Ellen G. White Estate

# IVYAKOZWE N'INTUMWA



ELLEN G. WHITE

# Ivyakozwe N’intumwa

**Ellen G. White**

**Copyright © 2021**
**Ellen G. White Estate, Inc.**

## Information about this Book

### Overview

This eBook is provided by the Ellen G. White Estate. It is included in the larger free Online Books collection on the Ellen G. White Estate Web site.

### About the Author

Ellen G. White (1827-1915) is considered the most widely translated American author, her works having been published in more than 160 languages. She wrote more than 100,000 pages on a wide variety of spiritual and practical topics. Guided by the Holy Spirit, she exalted Jesus and pointed to the Scriptures as the basis of one's faith.

### Further Links

A Brief Biography of Ellen G. White
About the Ellen G. White Estate

### End User License Agreement

The viewing, printing or downloading of this book grants you only a limited, nonexclusive and nontransferable license for use solely by you for your own personal use. This license does not permit republication, distribution, assignment, sublicense, sale, preparation of derivative works, or other use. Any unauthorized use of this book terminates the license granted hereby. (See EGW Writings End User License Agreement.)

### Further Information

For more information about the author, publishers, or how you can support this service, please contact the Ellen G. White Estate

at mail@whiteestate.org. We are thankful for your interest and feedback and wish you God's blessing as you read.

# Contents

Information about this Book . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . i
Ikigabane ca 1: Umugambi W' Imana Kw' Ishengero Ryayo . . . 5
Ikigabane ca 2: Inyigisho Kuri Bamwe Cumi Na Babiri . . . . . . . 11
Ikigabane ca 3: Igikorwa Gihambaye Cane . . . . . . . . . . . . . . . . 16
Ikigabane ca 4 : Pentekote . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 23
Ikigabane ca 5: Ingabire Ya Mpwemu . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 31
Ikigabane ca 6: Kw'irembo Ry' Urusengero . . . . . . . . . . . . . . . 38
Ikigabane ca 7: Kugabisha Indyadya . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 47
Ikigabane ca 8: Imbere Ya Sentare Nkuru Y'abayuda . . . . . . . 52
Ikigabane ca 9: Abakozi Indwi B'ishengero . . . . . . . . . . . . . . . 58
Ikigabane ca 10: Umukristo Wa Mbere Yapfiriye Ukwizera . . 65
Ikigabane ca 11: Ubutumwa Bwiza I Samariya . . . . . . . . . . . . . 69
Ikigabane ca 12: Uwahoze Ahama Abakristo Ahinduka Umwigishwa Wa Kristo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 75
Ikigabane ca 13: Imisi Yo Kwitegura . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 82
Ikigabane ca 14: Umuntu Arondera Ukuri . . . . . . . . . . . . . . . . . 88
Ikigabane ca 15: Kuvanwa Mw' Ibohero . . . . . . . . . . . . . . . . . . 95
Ikigabane ca 16: Ubutumwa Bwiza Muri Antiyokiya . . . . . . . 103
Ikigabane ca 17: Abamamaza Inkuru Nziza . . . . . . . . . . . . . . . 110
Ikigabane ca 18: Kwamamaza Ubutumwa Bwiza Mu Bapagani 117
Ikigabane ca 19: Umuyuda N' Umunyamahanga . . . . . . . . . . 124
Ikigabane ca 20: Gushira Hejuru Umusaraba . . . . . . . . . . . . . . 133
Ikigabane ca 21: Mu Ntara Zo Hirya . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 140
Ikigabane ca 22 : Tesalonike . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 146
Ikigabane ca 23: Beroya Na Atenayi . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 153
Ikigabane ca 24: Korinto . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 161
Ikigabane ca 25: Ivyete Ku Banyatesalonike . . . . . . . . . . . . . . 169
Ikigabane ca 26: Apolo I Korxnto . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 178
Ikigabane ca 27: Efeso . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 187
Ikigabane ca 28: Imisi Y' Imiruho N'amageragezwa . . . . . . . 194
Ikigabane ca 29: Ubutumwa Bwo Kugabisha No Kwinginga 198
Ikigabane oa 30: Guhamagarirwa Gushika Ku Rugero Rwo Hejuru . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 205
Ikigabane ca 31: Ubutumwa Bwaritwararitswe . . . . . . . . . . . . 214

Ikigabane ca 32: Ishengero Ritanga . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 222
Ikigabane ca 33: Gukorera Mu Ngorane . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 229
Ikigabane ca 34: Igikorwa Co Kwitanga . . . . . . . . . . . . . . . . . . 237
Ikigabane ca 35: Agakiza Ku Bayuda . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 246
Ikigabane ca 36: Ubuhakanyi I Galatiya . . . . . . . . . . . . . . . . . . 253
Ikigabane ca 37: Urugendo Rwa Nyuma Rwa Paulo I Yeru
Salemu . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 257
Ikigabane ca 38: Paulo Imbohe . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 264
Ikigabane ca 39: Urubanza Rw'i Kayisariya . . . . . . . . . . . . . . 277
Ikigabane ca 40: Paulo Yiyambaza Kayisari . . . . . . . . . . . . . . 283
Ikigabane ca 41: Habuze Gato Ngo Umpxndure . . . . . . . . . . . 286
Ikigabane ca 42: Ubwato Busabira Mu Kiyaga . . . . . . . . . . . . 290
Ikigabane ca 43: I Roma . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 295
Ikigabane oa 44 : Inzu Ya Kayisari . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 304
Ikigabane ca 45: Ivyandikiwe I Roma . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 309
Ikigabane ca 46: Mu Mwidegemvyo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 320
Ikigabane ca 47: Umunyororo Wa Nyuma . . . . . . . . . . . . . . . . 323
Ikigabane ca 48: Paulo Imbere Ya Nero . . . . . . . . . . . . . . . . . . 325
Ikigabane ca 49: Ikete Rya Nyuma Rya Paulo . . . . . . . . . . . . . 329
Ikigabane ca 50: Gucirwa Urwo Gupfa . . . . . . . . . . . . . . . . . . 337
Ikigabane ca 51: Umwungere W'umwizigirwa . . . . . . . . . . . . 341
Ikigabane ca 52: Umwizigirwa Gushika Kw'iherezo . . . . . . . 351
Ikigabane ca 53: Yohana Mukundwa . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 358
Ikigabane ca 54: Icabona C' Intamuheba . . . . . . . . . . . . . . . . . 363
Ikigabane ca 55: Guhindurwa N'ubuntu . . . . . . . . . . . . . . . . . . 370
Ikigabane ca 56: Patimo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 378
Ikigabane ca 57: Ihishurirwa . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 385
Ikigabane ca 58: Ishengero Ryatsinze . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 396

# Ikigabane ca 1: Umugambi W' Imana Kw' Ishengero Ryayo

Ishengero ni igikoresho Imana yatoranije ngo ikize abantu. Ryashinzwe ku bw'igikorwa, kandi ico ryashiriweho ni ugutwara inkuru nziza ku baremwe bose. Uhereye mw'itanguriro yari integuro y'Imana ko biciye mw' ishengero ryayo izokwereka isi yose ko yuzuye kandi yikwiye. Abagize ishengero, abo yahamagaye ikabakura mu mwiza kugira ngo ibazane mu muco wayo utangaje, bahamagariwe kwerekana ubwiza bwayo Ishengero ni ububiko bw'itunga ry'ubuntu bwa Kristo; kandi ikoresheje ishengero, Imana izomenyesha ubwa nyuma «abakuru n'abafise ububasha bw'ahantu ho mw'ijuru» urukundo rwayo rwose. Abanyefeso 3:10.

Mu Vyanditswe huzuye amasezerano atangaje yerekeye ishengero. «Inzu yanje izokwitwa inzu yo gusengeramwo ku bantu bose.» Yesaya 56 : 7. «Nzoziha umugisha hamwe n'uturambi duherereye ku musozi wanje; kandi nzorekura imvura mu gihe cayo; hazogwa imvura ihesha umugisha.» «Nzozimereza umurima w''akataraboneka, kandi ntizizosubira kumarwa n'inzara mu gihugu, canke guteterezwa n'abanyamahanga ukundi. Maze zizomenya yuko jewe Uhoraho Imana yazo ndi kumwe nazo, kandi yukw'ar'abantu banje, ari bo ab'inzu ya Isirayeli, Nik'Umwami Uhoraho agize. Kandi namwe ntama z'icibare canje, muri abantu, nanje ndi Imana yanyu, niko Umwami Uhoraho agize.» Ezekiyeli 34:26, 29-31.

«Ni mwebwe vyabona vyanje, niko Uhoraho agize, n'abasavyi banje natoranije, kugira ngo mumenye kandi munyizere, kandi mutahure ko ndi uwo ndi we : nta Mana yigeze kubumbwa hirya yanje, kandi nta yiz.oza mu nyuma. Jewe, jewe nyene ndi Uhoraho; kandi nta wundi Mukiza atari jewe. Ni jewe nabitangaje, ni jewe nakijije, ni jewe nabimenyekanishije, kandi nta yindi Mana yariho muri mwebwe: Ni co gituma ari mwebwe vyabona vyanje.» «Jewe Uhoraho naguhamagaye mu bugororotsi: nzogufata nkuzigame, ngutange ngo ubere abantu isezerano, n'abanyamahanga ubabere umuco; ngo uhumure impumyi, ngo usohore imbohe mw'ibohereo,

n'abicaye mu rnwiza ngo bave mu nzu y'imbohe.» Yesaya 43 .10-12 ; 42 :6, 7.

«Mu gihe co kwemererwamwo ndakwishuye, no ku musi wo gukirizwako ndagutabaye; kandi nzogukiza, ngushireho ube isezerano ry'abantu, kugira ngo usibure igihugu, utume basubizwa mw'ishamvu yabo yabaye imisaka, kandi ubwire imbohe uti ni musohoke; n'abari mu mwiza uti Ni museruke ahabona. Bazogenda barisha umwagambo ku mayira, kandi ahari uruharabuga
[5] hejuru ku misozi hazobabera ivyanya. Ntibazokwicwa n'inzara canke n'inyota, kandi indugumba ntizobahundagaza canke izuba: kuko uwabagiriye ikigongwe azobaja imbere akabashikana no ku masoko y'amazi. Kandi imisozi yanje yose nzoyihindura inzira, n'amarango yanje yose nzoyashira hejuru.... Ririmba, mwa majuru; nezerwa wa si we; turika muririmbe, mwa misozi miremire, kuko Uhoraho amaze umubabaro abantu biwe, kandi atewe akagongwe n'abahahajwe biwe. Ariko Siyoni ho haravuga, hati Uhoraho yarampevye, Umwami Imana yaranyibagiye. Mbega umugore yokwibagira umwana akiri kw'ibere, ngo yoye kugirira akagongwe ubura bwiwe ? Ni koko, abo boshobora kwibagira, ariko jeho sinoshobora kukwibagira. Ehe ngushushanije mu biganza vyanje; inzitiro zawe ndazihozako amaso.» Yesaya 49 :8-16.

Ishengero ni iboma ry'Imana, igisagara cayo c'ubuhungiro, ico Imana izigama mw'isi yagararije. Ikintu cose kigurisha ishengero kiba gihemukiye uwacunguje abantu amaraso y'Umwana wayo w'ikinege. Uhereye mbere na mbere, abantu b'intahemuka bamye bagize ishengero kw'isi. Mu runganwe urw'ari rwo rwose, Umwami yamye afise abarinzi biwe, bamye bashingira intahe uruvyaro babayemwo. Aba barinzi baratanze ubutumwa bwo kugabisha; hanyuma hageze ko bashira hasi ibirwanisho vyabo, abandi nabo bakomeje igikorwa. Imana yagiriranye amasezerano n'ivyo vyabona, gutyo ifatanya ishengero ryo mw'isi n'ishengero ryo mw'ijuru. Yararungitse abamarayika bayo gukorera ishengero ryayo, kandi amarembo y'i kuzimu ntiyashoboye kunesha abantu bayo.

Mu binjana vy'agahamo, indyane n'umwiza, Imana yarashigikiye ishengero ryayo. Nta gicu na kimwe cigeze kigwa kuri ryo itaciteguriye; nta nkomezi n'imwe yigeze ihaguruka kurwanya igikorwa cayo itayibonye imbere y'igihe. Vyose vyashitse nk'uko yabivuze bitaraba. Ntiyibagiye ishengero ryayo, ahubwo yan-

ditse ibizoshika ibicishije mu majambo y'abavugishwa nayo, kandi ivyo Mpwemu wayo yahumekeye abavugishwa nayo ngo babivuge bitaraba vyarashitse. Imigambi yayo yose izoshirwa mu ngiro. Icagezwe cayo gifatanye n'intebe yayo y'ubwami, kandi nta bushdbozi bw'ikibi bushobora kugisenyura. Ukuri guhumekwa kandi kukarindwa n'Imana ; kandi kuzotsinda ikikurwanya cose.

Mu myaka y'umwiza mu vya Mpwemu ishengero ry'Imana ryabaye nk'igisagara cubatswe ku musozi. Uko ibihe vyakurikiranye, uhereye ku ruvyaro ugashika ku rundi, ukuri kutagabanije kw'ijuru kwaragaragajwe mu mbibe zaryo. Naho ryogaragara nk'irinyantegenke n'iritosekaye, ishengero ni co kintu Imana yitwararitse mu buryo budasanzwe kuruta ibindi. Muri ryo niho igaragariza ubuntu bwayo, ni naho inezererwa guhishura ububasha bwayo ngo ihindure imitima. [6]

Kristo arababaza ati «Ubwami bw'Imana tubushushanye n'iki ? Canke tubusobanurishe umugani ki ?» Mariko 4 :30. Ntiyari kuronka ico yobugereranya ko. Abami b'isi bategekesha igikenye; ariko mu bwami bwa Kristo ikirwanisho cose c'umubiri, igikoresho cose co gutwaza igitugu, nta kibanza bifise. Ubwo bwami, intumbero yabwo, ni ugushira hejuru, ugukuza, n'ukwubahiriza ikiremwa muntu. Mw'ishengero harangwa ubuzima bwera, bwuzuye ingabire zitari zimwe kandi bwuzuye Mpwemu Yera. Abanywanyi baryo bategerezwa kuronkera umunezero wabo mu munezero w'abo bafasha kandi bahezagira.

Igikorwa Imana yiteguye gukorera mw'ishengero ryiwe ni igikorwa gitangaje, kugira ngo izina ryayo rihabwe icubahiro. Ingereranyo y'iki gikorwa iboneka mw'iyerekwa rya Ezekiyeli ry'uruzi ruvura : «Aya mazi atembera i Burasirazuba, azomanuka mu bugaragwa, arinde ashika mu kiyaga c'umunyu: niyashika muri ico kiyaga, azokiza amazi yo muri co. Kandi aho urwo ruzi ruzoshika hose ikintu cose kizima gikunda kunyogomba mu mazi kizobona uko kibaho :...kandi ku nkombe z'urwo ruzi, hakurya no hakuno, hazomera igiti cose cama ibiribwa; ibibabi vyavyo ntaho bizokabirana, kandi n'ivyo vyama ntaho bizobura : bizohora vyera bijana n'ukwezi uko gutashe, kukw'amazi abitunga ava ahera h'urusengero: Ivyo vyama bizoba ivyo kurya, n'ibibabi vyavyo bizoba umuti wo kuvura.» Ezekiyeli 47 :8-12.

Uhereye mbere na mbere Imana yakoreye mu bantu bayo ngo izanire imihezagiro isi. Biciye mu bugororotsi bwa Yosefu, ubuzima bwa burya bwoko bwose bwararinzwe. Biciye muri Daniyeli, Imana yakijije abanyabwenge bose b'i Babuloni. Kandi uku gukizwa kwose kugendereye kutubera icirwa ; kwerekana imihezagiro mu vya Mpwemu Imana yahaye isi biciye mu migenderanire yabo n'Imana Yosefu na Daniyeli basenga. Umuntu wese umutima wa Kristo ubamwo, umuntu wese azereka isi urukundo rwiwe, ni umukozi akorana n'Imana ngo abantu bose bahezagirwe. Uko ahabwa n'Umukiza ubuntu ngo abuhe abandi, mu buzima bwiwe hose hatembamwo amasoko y'ubuzima bwa Mpwemu.

Imana yatoranije Isirayeli ngw'ihishurire abantu kamere yayo. Yifuza ko baba nk'amariba y'agakiza mw'isi. Bahawe ivyavugishijwe vyo mw'ijuru, uguhishurirwa kw'ubugombe bw'Imana. Mu misi ya mbere ya Isirayeli, ibihugu vy'isi yose, bivanye n'ibikorwa vy'agatituro, vyari vyaribagiye Imana. Bari barayimenye hambere aho; ariko kubera «batayubashe nk'Imana, ntibayishimire; ahubwo bagacika abiyumvira ivy'ubusa,... umutima wabo w'imburabwenge wacuze umwiza.» Abaroma 1:21.

[7] Ariko n'aho vyabaye bityo Imana ntiyabaranduye. Yigiriye umugambi wo kubaha akandi jcaryo ko kwongera kuyimenya biciye mubwoko bwayo yatoranije. Mu buryo bw'inyigisho z'imihango yo gutanga -ibimazi, Kristo yategerezwa gushirwa hejuru imbere y'amahanga yose, kandi abo bose bamwihweje bagahabwa ubugingo. Kristo yari ishimikiro ry'imihango y'Abayuda. Ibitutu n'ingereranyo vyose vyari impfunyapfunyo y'ubuhanuzi bw'inkuru nziza, uburyo bukubiyemwo amasezerano y'agakiza.

Ariko Abisirayeli baribagiye amahirwe yabo atagira akagero yo kuba ivyariho vy'Imana. Baribagiye Imana ntibarangura igikorwa cabo cera. Imihezagiro baronse ntiyabereye amahanga umuhezagiro. Inyungu zabo zose bazikwegeyeko mukwihesha icubahiro. Baritandukanije n'amahanga ngo birinde ikigeragezo. Ivyo Imana yari yababujije vyo kwifatanya n'abasenga ibigirwamana ngo bibakingire imigenzo y'abapagani, babikoresheje mu kwubaka uruhome rubatandukanya bo ubwabo, mbere n'ayandi makungu. Banse gukora igikorwa Imana yari yabasavye, bongera kandi banka kuyobora abandi mu vy'idini n'akarorero k'ubugororotsi.

Abaherezi n'abarongozi biboheye mu kamenyero k'umugenzo w'imihango y'idini. Banyurwa n'idini rishingiye ku vyagezwe, hanyuma ntivyashobotse ko bageza ku bandi ukuri kuzima kw'ijuru. Bibwiye ko ubugororotsi bwabo bubahagije, kandi ntibifuza ko ikintu gisha congerwa mw'idini ryabo. Ubugombe bwiza bw'Imana ku bantu ntibabwakiriye nk'ikintu kiri hanze yabo, ahubwo babufashe nk'ikintu kibabereye kubw'ibikorwa vyabo vyiza. Ukwizera gukorera mu rukundo kandi kukoza umutima ntikwashobora kuronka ikibanza, kubwo kwifatanya n'idini ry'Abafarisayo, rigizwe n'imihango n'amategeko y'abantu.

Imana yavuze kuri Isirayeli iti:«Yamara nari naguteye uri umuzabibu w'ubwoko, uri urugemwe rutoretse rwose: None se wabaye ute ko wampindukiye igiti c'umuzabibu w'ikijakija w'icaduka ?» Yeremiya 2:21. «Abisirayeli bar'umuzabibu utotahaye, wama inzabibu zawo.» Hoseya 10 :1. «None rero mwa baba i Yerusalemu, namwe bagabo b'i buyuda, ndabinginze mudutature, twe n'uruzabibu rwanje. Ico nari gukorera uruzabibu rwanje ntarukoreye ni igiki ? Ko naziga ko ruzokwama inzabibu, ni iki catumye rwama ibijabija vy'inzabibu ?

«None rero reka mbereke ivyo ngira ngirire uruzabibu rwanje : ngira- nkureho ururombero rwarwo, maze rwonwe ruvumburwe; kandi nsambure uruzitiro rwarwo, rucibwe iyondoyondo; kandi ndarururirike; ntiruzotuturirwa, ariko ruzomeramwo imikere n'amahwa; kandi nzobuza ibicu vyoye kurugwisha kw'imvura. Kuko uruzabibu rw'Uhoraho Nyen'ingabo ari rwo nzu ya Isirayeli, kandi a'bagabo b'i Buyuda ari bo muzabibu wamuhim- [8]
bara; kandi yazigamwo imanza zibereye ariko asangamwo uguhahaza: yabazigamwo ubugororotsi ariko abasangamwo amaborogo.» Yesaya 5 :3-7. «Iyidakomeye ntimwayisindagije, n'iyirwaye ntimwayivuye, n'iyivuniste ntimwayunze, n'iyirukanywe ntimwayigarukanye, canke ngo murondere iyazimiye; ariko mwazitwaje igitugu n'amanyama. Ezekiyeli 34 :4.

Abarongozi b'Abayuda biyumvira ko bafise ubwenge bwinshi ku buryo badakeneye kwigishwa, ko bagororotse cane ku buryo batokenera agakiza, ko bafise icubahiro gikomeye ku buryo batokenera icubahiro kivuye kuri Kristo. Umukiza yabateye umugongo, abitsa abandi amahirwe bakinishije n'igikorwa bafashe minenerwe. Ubwiza bw'Imana butegerezwa guhishurwa, ijambo

ryayo rigashinga imizi. Ubwami bwa Kristo butegerezwa kwimikwa mw'isi. Agakiza k'Imana gategerezwa kumenyekana mu bisagara vyo mu bugaragwa; kandi abigishwa bahamagariwe gukora igikorwa abarongozi b'Abayuda bananiwe gukora.

# Ikigabane ca 2: Inyigisho Kuri Bamwe Cumi Na Babiri

Kugira ngo babandanye igikorwa ciwe, Kristo ntiyatoye abize canke imvuzi zo mu bagize urwego Rukuru rw'Ubucamanza rw'Abayuda, canke ubushobozi bwa Roma. Yarenganye abigisha b'Abayuda biyamamaza ko ari abagororotsi, uwo Mwigisha Karuhariwe atoranya abantu biyoroheje batize amashure, ngo bamamaze ukuri kwategerezwa kunyiganza isi. Abo bantu yari afise intumbero yo kubamenyereza n'ukubigisha ngo babe abarongozi b'ishengero ryiwe. Nabo bategerezwa kwigisha abandi n'ukubarungikana ubutumwa bw'inkuru nziza. Kugira ngo baroranirwe mu gikorwa cabo bategerezwa guhabwa ubushobozi bwa Mpwemu Yera. Ubutumwa Bwiza nti bwari kwamamazwa n'ubushobozi cank'ubwenge bw'abantu, kiretse ubushobozi bw'Imana.

Mu myaka itatu n'igice abigishwa bakurikiye inyigisho z'Umwigisha aruta abigisha bose isi yigeze kubona. Kristo yabateguye ngo bakore igikorwa ciwe mu kuvugana nabo amaso mu yandi no mu kubana nabo.Uko bukeye uko bwije baragendana nawe kandi bakavugana nawe, bakumva amajambo yiwe aremesha abarushe n'abaremerewe, kandi bakibonera ububasha bukiza abarwaye n'abatuntuye. Rimwe na rimwe yabigisha yicaye mu mbavu z'umusozi; ahandi naho ari i ruhande y'ikiyaga, canke bagendagenda mu nzira yarabahishurira amayobera y'Ubwami bw'Imana. Aho hose imitima yari yuguruye ngo yakire ubutumwa buva ku Mana, yarabahishurira ukuri kw'inzira y'agakiza. Ntiyategetse [9]
abigishwa gukora ibi n'ibi, ahubwo yavuze ati: «Nimunkurikire.» Mu ngendo ziwe mu misozi no mu bisagara, yajana nabo, ngo bibonere ingene yigisha abantu. Bagendana nawe aho aja hose. Barasabikanya uburyo buke bafise, kandi nk'uko vyamushikira, nabo nyene rimwe na rimwe barasonza mbere kenshi bakaruha. Mu mabarabara yuzuye isinzi ry'abantu, ku nkengera y'ikiyaga, mu

gahinga ka nyaga nande, baba bari kumwe nawe. Baramubonye mu vyiciro vyose vy'ubuzima.

Gutoranya bamwe cumi na babiri, nikwo kwabaye intambuko ya mbere mu gushinga uburongozi bw'ishengero ryategerezwa kubandanya igikorwa ciwe kw'isi, Kristo amaze kugenda. Ku vyerekeye iryo robanura, Ivyanditwe bivuga ngo «Maze aduga umusozi muremure, ahamagara abo agomba. Baza kuri We. Atoranya cumi na babiri bo kubana nawe, maze ngo abatume kwigisha.» Mariko 3:13, 14. Ehe ingene bitangaje. Nimwitegereze Umwami w'ijuru akikujwe na bamwe cumi na babiri yarobanuye. Yiteguriye kubarobanura kubw'igikorwa cabo. Mu buryo bw'ijambo ryiwe na Mpwemu wiwe, yiteguye gushira agakiza imbere y'abantu bose, akoresheje ibikoresho vy'intege nke.

Imana n'abamarayika barabanye ivyo bintu umunezero n'akanyamuneza. Data yari azi ko kubwo abo bantu umuco w'ijuru uzokayangana; ko amajambo bazovuga nk'ivyabona vy'Umwana wiwe azosamirana kuva ku ruvyaro gushika ku rundi, kugeza ku muhero w'isi. Abigishwa bategerezwa kugenda nk'ivyabona vya Kristo, bagatangariza isi ko bamubonye kandi bamwumvise. Igikorwa cabo cari gihambaye kuruta ibindi vyose abana b'abantu bigeze guhamagarirwa gukora; gusa cari ica kabiri ku ca Kristo ubwiwe. Bategerezwa gukorana n'Imana ngo bakize abantu. Nk'uko mw'Isezerano rya kera abakurambere cumi na babiri bahagarara nk'ivyariho vya Isirayeli, ni ko n'intumwa cumi na zibiri zahagarara mu kibanza c'ishengero ry'ubutumwa bwiza. Mu gihe c'igikorwa ciwe, Kristo yatanguye gusenyura igihome catandukanya Abayuda n'abanyamahanga, no gutangaza agakiza ku baremwe bose. Naho yari Umuyuda, yarivanze n'Abasamariya atagoberewe, ahindura ubusa imigenzo ya Gifarisayo y'Abayuda kubwo abo bantu bakengerwa. Yararara mu nzu zabo, akarira ku meza zabo, kandi akigishiriza mu mayira yabo.

Umukiza yari anyotewe guhishurira abigishwa biwe ukuri kwerekeye guhomvora «ca gisika co hagati» catandukanya Isirayeli n'ayandi mahanga-ukuri yuko abanyamahanga bategerezwa gusangira iragi n'Abayuda kandi «bagasangira Isezerano ryayo muri Kristo kubwo ubutumwa bwiza.» Abanyefeso 2 :14; 3 :6.

[10] Uku kuri yakugaragaje ku ruhande rumwe igihe yahemba ukwizera kw'umutegetsi arongoye abasirikare ijana i Kaperenawumu,

n'igihe yigisha ubutumwa bwiza abantu b'i Sikari. Ariko ku buryo bugaragara ukwo kuri kwahishuwe igihe yagendera i Feniciya, agakiza umukobwa w'Umunyakananikazi. Ivyo bintu vyafashije abigishwa gutahura ko muri abo benshi baraba nk'abatabereye agakiza, harimwo imitima ishonje umuco w'ukuri.

Muri ubwo buryo rero, Kristo yashaka kwigisha abigishwa uku kuri ko mu bwami bw'Imana ata mbibe zibamwo, nta moko, nta banyen'icubahiro; ko bategerezwa kuja mu mahanga yose babashiriye ubutumwa bw'urukundo rw'Umukiza. Ariko batahuye neza batevye kw'Imana «yaremye amahanga yose y'abantu, ibakuye mu muntu umwe, ngo basagaze mw'isi yose, yashinze ibihe vy'imyaka ko bikuranwa uko yageze, icira abantu imbibe z'aho baba, kugira ngo barondere Imana, ngo namba kumbure bakababakavye boyibona, naho itari kure y'umuntu n'umwe muri twebwe.» Ivyakozwe n'Intumwa 17 :26, 27.

Muri abo bigishwa ba mbere harimwo ubudasa bwigaragaza. Basabwa kubera isi abigisha, kandi bari bafise kameremere z'ubwoko bwinshi. Kugira baroranirwe mu gikorwa bahamagariwe, abo bantu bari bafise ibibatandukanya vyinshi, bari batandukanye mu buryo baremwe no mu mibereho y'ubuzima, bari bakeneye ubumwe mu buryo bwo gutahura, bwo kwiyumvira no gukora. Ubwo bumwe nibwo Kristo yashaka gushikako. Gutyo rero yari gushobora kubagira umwe nawe. Umwitwarariko w'igikorwa ciwe ku bwabo ubonekera mw'isengesho yatuye Se: «Kugira ngo bose babe umwe, nk'uko Wewe, Data, uri muri jewe, nanje nkaba muri Wewe, ngo nabo abe ariko baba muri twebwe, ngo isi yizere ko ari Wewe wantumye, ukabakunda nk'uko wankunze.» Yohanal7:21, 23. Isengesho ryiwe ry'urudaca yabasengera ryari ko bokwerezwa mu kuri; kandi yasenga afise ivyizigiro, azi ko itegeko ry'Ubushobozi Bwose ryatanzwe kuva isi itararemwa. Yari azi ko Ubutumwa bwiza bw'Ubwami buzovugirwa mu mahanga yose ngo bubabere icabona; yari azi ko ukuri kwambaye ubushobozi bwa Mpwemu Yera kuzotsinda intambara y'ikibi, kandi ko umusi uri izina ibendera ryasizwe amaraso rizohungabanira ku bantu biwe bamukurikiye.

Kubera ko igikorwa ca Kristo cagira kirarigire, kandi akabona ko ari ngombwa bidatevye areke abigishwa biwe babandanye igikorwa atari kumwe nabo ngo abarongore, yashaka kubatera intege no kubategura kubw'ibihe bizoza. Ntiyabahendesheje ivyizigiro

bitariho. Yasomye nk'igitabo cuguruye ibizotegerezwa gushika. Yari azi ko bidatevyye agiye gutandukana nabo, akabasiga nk'intama hagali y'amabingira. Yari azi ko bazohamwa, ko bazokwirukanwa
[11] mu masinagogi, kandi bagatererwa mw'ibohero. Yari azi ko, kubwo kumushingira intahe nka Mesiya, bamwe muri bo bazokwicwa.

Yarababwiye ibijanye n'ivyo. Mu kuvuga kazoza ntiyariye umunwa kandi yadomyeko urutoke, ko mu mageragezwa azobashikira bazotegerezwa kwibuka amajambo yiwe kandi bagakomezwa no kumwizera nk'Umucunguzi. Ariko yarababwiye n'amajambo y'ivyizigiro n'ayo kuremesha, ati» Ntimuhagarike imitima yanyu, mwizere Imana, nanje munyizere. I muhira kwa Data hari amazu menshi, iyo aba atariho, mba ndabibabwiye, kuko ngiye kubategurira ahanyu. Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana i wanje, ngo aho ndi namwe abe ariho muba. Kandi iyo nja murazi inzira ijayo.» Yohana 14 :l-4. Ku bwanyu naraje mw'isi; ku bwanyu narakoze. N'ubwo ngiye nzokomeza kandi gukora ntiziganya ku bwanyu. Naje mw'isi ngo ndabihishurire, kugira ngo mwizere. Ngiye kwa Data ari we So, kugira ngo mfashanye na We ku bwanyu.

N'ukuri, n'ukuri ndababwire: Uwunyizera, ibikorwa nkora nawe azobikora : kandi azokora ibibiruta, kuko Jewe ngiye kwa Data.» Yohana 14:12. Muri aya majambo, Kristo ntiyashatse kuvuga ko abigishwa bazokora ibitangaza bihambaye kuruta ivyo yakoze, ahubwo igikorwa cabo kizoba kinini mu bwaguke kuruta iciwe. Ntiyatunze urutoke ku gukora ibitangaza gusa, ahubwo ku bizokoreka vyose bikozwe na Mpwemu Yera. Yavuze ati: «Umwitsa aho azozira, Uwo nzobarungikira ava kuri Data, niwe Mpwemu w'ukuri akomoka kuri Data, Uwo niwe azonshingira intahe, kandi namwe nyene muranshingira intahe, kuko mwari kumwe nanje uhereye mbere na mbere.» Yohana 15 :26, 27.

Aya majambo yashitse ku buryo butangaje. Mpwemu Yera amaze kumanuka, abigishwa bujujwe n'urukundo bamukunda n'urwo bakunda abo yapfiriye, ku buryo imitima yorohejwe n'amajambo bavuga hamwe n'amasengesho basenga. Bavuga basunitswe n'ubushobozi bwa Mpwemu ; kandi ku bw'ububasha bw'ubwo bushobozi, ibihumbi n'ibihumbi barahindukiriye Imana.

Nk'ivyariho vya Kristo, intumwa zategerezwa gukora ku mitima y'abari mw'isi. Kuba bari abantu bicisha bugufi ntivyagaban-

ije ijunja ryabo, ahubwo vyararyongereje; kuko ivyiyumviro vy'ababumviriza vyavanywe kuri bo vyerekezwa ku Mukiza; We, naho ataboneka, yakomeje gukorana nabo. Uburyo butangaje bw'inyigisho z'intumwa, amajambo ashize amanga kandi yo kwizerwa, yategerezwa kwemeza bose ko badakorera mu nkomezi zabo, ahubwo ko bakoreshwa n'ubushobozi bwa Kristo. Mu kwicisha bugufi, berekana ko uwo Abayuda babamvye yari Umwami w'ubugingo, Umwana w'Imana Nzima, kandi ko ibikorwa vyose bakora babikoze mw'izina ryiwe.

Mu kiganiro ca nyuma yagiranye n'abigishwa biwe mw'ijoro [12]
buca abambwa, Umukiza ntiyacishije mu kanwa ivy'imibabaro yari yarababajwe kandi n'ubu yari imurindiriye. Ntiyavuze ivy'agasuzuguro kari kamurindiriye, ahubwo yagerageje kurongora ubwenge bwabo ku bizokomeza ukwizera kwabo, abazana guhanga amaso umunezero urindiriye uwuzotahana intsinzi. Yahimbawe n'iciyumviro ko yari ashoboye kandi ko azokorera abamukurikiye ibirengeye ivyo yasezeranye; ko muri We hazotembamwo urukundo n'impuhwe, bizokweza urusengero rw'umutima, rugahindura abantu abafise kamere nk'iyiwe; ko ukuri kwiwe kwambaye ubushobozi bwa Mpwemu, kuzogenda nk'uwunesha kandi kukanesha.

Yababwiye ati: «Ivyo ndabibabwiye kugira ngo mugire amahoro muri jewe. Mw'isi muri n'amarushwa, ariko ni muhumure, jewe naranesheje isi.» Yohana 16 :33. Kristo ntiyaneshejwe canke ngo acike intege; kandi intumwa nazo nyene zategerezwa kwerekana ukwizera kwihangana nk'uko. Basabwa gukora nk'uko yakoze, bakamwisunga ngo bahabwe inkomezi. Naho inzira yabo yategerezwa kuzitizwa n'ibidashoboka mu maso yabo, ku bw'ubuntu bwiwe bategerezwa gukomeza urugendo, ata kintu na kimwe kibaca intege, ahubwo buzuye ivyizigiro. Kristo yari yarangije igikorwa yari yahawe gukora. Yari yakoranije abazobandanya igikorwa ciwe mu bantu. Niho yavuga ati: «Nashimagijwe muri bo. Sinkiri mw'isi, ariko bo baracari mw'isi, nanje ndaje kuri Wewe. Data Wera, ubazigamire mw'izina ryawe wampaye, ngo babe umwe nk'uko natwe turi.» «Sinsabira aba gusa, ariko ndasabira n'abo bazonyizera ku bw'ijambo ry'aba, kugira ngo bose babe umwe;... Jewe mbe muri bo, nawe ube muri Jewe, ngo bahingurwe babe umwe, kugira ngo isi imenye ko ari Wewe wantumye, ukabakunda, nk'uko wankunze.» Yohana 17 :10,11,20-23

## Ikigabane ca 3: Igikorwa Gihambaye Cane

Inyuma y'urupfu rwa Kristo, abigishwa babuze gato ngo batsindwe n'ugucika intege. Umwigisha wabo baramwihakanye, bamucira urubanza, mbere baramubamba. Abaherezi n'abategetsi bari bamushinyaguriye ngo «Yakijije abandi; ariko we ntashobora kwikiza. Namba ari Umwami w'Isirayeli, niyivane kumusaraba, niho tuzomwizera.» Matayo 27 :42. Izuba ry'ivyizigiro vy'abigishwa ryari ryarenze, kandi ijoro ryari ryatwikiriye imitima yabo. Kenshi barasubiyemwo aya majambo : «Twari twishimye yuko ari we azocungura Abisirayeli.» Luka 24 :21. Bari bigunze kandi barwaye mu mutima, bibuka amajambo yiwe : Ko bagirira batyo igiti kibisi, none icumye kizogirirwa gite ? Luka 23 :31.

[13] Yesu yari yagerageje kenshi kwugururira kazoza abigishwa biwe, ariko ntibari bitayeho kwibaza ku vyo yavuze. Ku bw'ivyo, urupfu rwiwe rwabashitseko giturumbuka; hanyuma, bamaze gusubiramwo kahise bakabona ingaruka y'ukutizera kwabo, buzuye agahinda. Igihe Kristo yabambwa, ntibizeye ko azozuka. Yari yaravuze yemanga ko azozuka ku musi ugira gatatu, ariko ntibitayeho kumenya ico yashaka kuvuga. Uku kudasobanukirwa kwatumye igihe co gupfa kwiwe bihebura cane. Baratakaje ivyizigiro. Ukwizera kwabo ntikwashoboye kubona inyuma y'igitutu Satani yari yatwikirije amaso yabo. Vyose kuri bo vyasa n'urwijiji n'amayobera. Iyo bizera amajambo y'Umukiza, ibaze agahinda kenshi bari kwikingira ! Kubwo kwicwa n'ugucika intege, akababaro, n'ukwihebura, abigishwa bakoraniye mu cumba co hejuru, bariyugarana, batinya ko ivyabaye ku Mwigisha wabo vyobashikira. Aha niho Umukiza, amaze kuzuka, yababonekeye.

Kristo yamaze imisi mirongo ine kw'isi, ategura abigishwa ku bw'igikorwa cari kibarindiriye, yongera abasobanurira ivyo batari bashoboye gutahura hambere. Yaratanze imburi zerekeye kugaruka kwiwe, ingene Abayuda bazomwiyamiriza, hamwe n'urupfu rwiwe, yerekana ko ayo majambo y'abavugishwa n'Imana yasohoye ijambo ku rindi. Yarababwiye ko bategerezwa kuraba izo mburi zaso-

hoye nk'ikimenyamenya c'ubushobozi buzobaherekeza mu bikorwa vyabo vya kazoza. «Maze abugurura ubwenge ngo batahure,» «ngo batahure ivyanditswe. Arababwira, ati niko vyanditswe yuko Kristo akwiye kubabazwa no kuzuka mu bapfuye ku musi ugira gatatu : kandi yuko ukwihana no guharirwa ivyaha bikwiye kuvugwa mw'izina ryiwe mu mahanga yose, uhereye i Yerusalemu.» Hanyuma yongerako ati: «Namwe muri ivyabona vyo kuvuga ivyo.» Luka 24 :45-48.

Muri iyo misi Kristo yamaze ari kumwe n'abigishwa biwe, bungutse ibintu bishasha. Uko bumva Umwigisha wabo Mukundwa asobanura Ivyanditswe abigereranya n'ivyabaye vyose, ukwizera bari bafise kuri We kwashinze imizi. Barashoboye ku kugera ku rugero bashobora kuvuga bati «Ndazi Uwo nizeye.» 2 Timoteyo 1:12. Batangura gutahura ubwoko n'ubwaguke bw'igikorwa cabo, kubona ko bategerezwa kubwira isi ukuri bari barahawe. Ivyashitse mu buzima bwa Kristo, urupfu n'izuka ryiwe, imburi zidoma urutoke kuri ivyo bintu, amabanga y'umugambi w'agakiza, ubushobozi bwa Yesu bwo kubabarira ivyaha - Ibi bintu vyose bari bavyiboneye, kandi bategerezwa kubitangariza isi. Basabwa kuvuga ubutumwa bwiza bw'amahoro n'agakiza biciye mu kwihana n'ubushobozi bw'Umukiza.

Imbere y'uko aduga mw'ijuru, Kristo yahaye abigishwa biwe igikorwa bajejwe. Yababwiye ko bategerezwa gushira mu ngiro amajambo y'umurage isi yashikirijwemwo ubutunzi bw'ubugingo budashira. Yarababwiye ati muri ivyabona vy'ubuzima bwanje [14]
bwo kwitanga ku bw'isi. Mwarabonye ibikorwa nakoreye Isirayeli. Kandi naho abantu banje batoza kuri Jewe ngo baronke ubugingo, naho abaherezi n'abategetsi bankoreye ibitavugwa, naho batanyakiriye, bazohabwa akandi karyo ko kwakira Umwana w'Imana. Mwarabonye ko abo bose baje kuri Jewe bakatura ivyaha vyabo nabakirije yompi. Uwuzoza kuri Jewe sinzomwirukana. Bigishwa banje, ni mwebwe ndungikanye ubu butumwa bw'imbabazi. Butegerezwa guhabwa Abayuda n'abanyamahanga- Mubanze kuri Isirayeli, hanyuma mutandukire ku mahanga yose, indimi, n'amoko. Abizera bategerewa gukoranirizwa mw'ishengero rimwe.

Igikorwa c'ubutumwa bwiza ni itegeko rikomeye ry'ubwami bwa Kristo, ryo gutwara ubutumwa mw'isi yose. Abigishwa bate-

gerezwa gukorana ubwira ku bw'imitima, bagaha bose ubutumire bw'ikigongwe. Ntibasabwa kurindira abantu ngo baze kuri bo; bategerezwa gusanga abantu, bakabashikiriza ubutumwa babafitiye.

Abigishwa basabwa gukora igikorwa cabo mw'izina rya Kristo. Ico bavuga, ico bakora, vyose bitegerezwa gukwegakwegera abantu kw'izina ryiwe, kuko rifise inkomezi z'ubugingo abanyavyyaha bashobora gukirizwamwo. Ukwizera kwabo kwategerezwa kwubakira muri We, We soko ry'imbabazi n'ubushobozi. Mw'izina ryiwe niho basabwa gusaba Data ivyo bakeneye, kandi bakaronka inyishu. Bategerezwa kubatiza mw'izina rya Data, n'iry'Umwana, n'irya Mpwemu Yera. Mw'izina rya Kristo niho hategerezwa kuba ijambo ngenderwako, ikimenyetso kibatandukanya n'abandi, n'isoko ryo kuroranirwa kwabo. Nta kintu na kimwe coshobora kwemerwa mu bwami bwiwe kitambaye izina ryiwe.

Igihe Kristo yabwira abigishwa biwe ati, nimugende mw'izina ryanje gukoraniriza mw'ishengero abizeye bose, yababariye ku mugaragaro ko bategerezwa kuguma ari abantu biyorosha. Uko bazokwiyorosha, ntibishire imbere, niko bazorushiriza gukwegakwegera abantu gukora ivyiza. Abigishwa basabwa kuvugana ukwiyorosha gusa na kwa kundi Kristo yavugana. Bategerezwa gushimangira mu bantu babumviriza ivyigwa yari yarabigishije.

Kristo ntiyabwiye abigishwa biwe ko igikorwa cabo kizoba coroshe. Bazotegerezwa kurwana «n'abakuru, n'abafise ububasha, n'abaganza iyi si y'umwiza, n'impwemu mbi z'ahantu ho mw'ijuru.» Abanyefeso 6 :12. Ariko ntibazorekwa ngo barwane bonyene. Yarababwiye ko azobana nabo; kandi ko nibabandanya kuba mu kwizera, bazokorera musi y'inkinzo y'Inshoboravyose. Yabategetse ati nimube intwari, kandi mukomere; kuko Uwukomeye kuruta abamarayika azoba ku ruhande rwabo-Umukuru w'ingabo z'ijuru. Yarategekanije ibikenewe vyose mu gikorwa cabo, kandi
[15] yiremeka umutwaro wo kugishikana ku ntsinzi. Igihe cose bari kuguma muri We, ntibari gutsindwa. Yabategetse ati nimugende mu mahanga yose. Nimugende mu gace ka kure k'umububumbe w'isi kariko abantu, kandi mwizere ko n'aho hantu nzoba ndi kumwe namwe. Mukorane ukwizera n'ivyizigiro; kuko nta na rimwe nzokwigera ndabaheba. Nzobana namwe imisi yose, ndabafasha kurangura ivyo mujejwe, ndabayobora, ndabakomeza, ndabeza, nd-

abashigikira, ndabaha kuroranirwa mu kuvuga amajambo azokwegakwegera abantu mw'ijuru.

Ikimazi ca Kristo ku bw'abantu cari cuzuye kandi kirangiye neza. Ivyasabwa ku bw' impongano vyari vyakozwe. Igikorwa cari camuzanye kw'isi cari carangiye. Yari yatsindiye ubwami. Yari yaburwaniye na Satani arabumunyaga, aca aba samuragwa w'ibintu vyose. Yariko aragenda agana intebe y'ubwami y'Imana, ngo ahabwe icubahiro n'ingabo zo mw'ijuru. Yambaye ubushobozi butagira imbibe, aha abigishwa biwe igikorwa cabo: «Nimugende, muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatiza mw'izina rya Data, n'iry'Umwana, n'irya Mpwemu Yera: Mubigishe kwitondera ivyo nabageze vyose. Umve, ndi kumwe namwe imisi yose, gushitsa ku muhero w'isi.» Matayo 28 :19,20.

Imbere gato y'uko atandukana n'abigishwa biwe, Kristo yarongeye arabemangira uko ubwami bwiwe bumeze. Yarabibukije ibintu yari yarabigishije hambere, bijanye nabwo. Yarababwiye neza ko ata mugambi wo gushinga muri iyi si ubwami bw'akanya gato. Ntiyagenewe kwima nk'umwami wo kw'isi ku ntebe ya Dawidi. Igihe abigishwa bamubaza ngo «Mwami, iki gihe nico ugira ugarukane ingoma y'Abisirayeli ?» Yabishuye ati: «si ivyanyu kumenya imisi canke ibihe Data yashinze n'ububasha bwiwe wenyene.» Ivyakozwe n'Intumwa 1 :6, 7. Nti vyari bikenewe ko barondera kandi kubona kure muri kazoza, uguhishurirwa yari yarabashoboje kwari guhagije. Igikorwa cabo cari ico kwamamaza ubutumwa bwiza.

Hari hasigaye gato ngo abigishwa ntibongere kubona Yesu, ariko bari bagiye guhabwa ubushobozi bushasha. Bari bagiye guhabwa Mpwemu Yera ku rugero runengesereye, akabashirako ikidodo ku bw'igikorwa cabo. Umukiza yari yavuze ati: «Ehe, ngira ndabarungikire ico Data yabasezeraniye; ariko mugume mu gisagara, kugeza aho muzokwambikirwa ubushobozi buvuye mw'ijuru.» Luka 24 :49. «Kuko Yohana mu vy'ukuri yabatirisha amazi, ariko mweho, mu misi itari myinshi, muzobatizwa na Mpwemu.» «Muzohabwa ubushobozi, Mpwemu Yera ni yabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu, n'i Yudaya hose, n'i Samariya, no gushika ku mpera y'isi.» Ivyakozwe n'Intumwa 1 :5

Umukiza yari azi ko ata jambo, n'aho ryoba ritomoye neza gute, rizokworosha imitima ikomantaye canke kumena ubuzima bw'umuntu akunda isi kandi yikunda. Yari azi ko abigishwa

[16] bategerezwa kuronka ingabire yo mw'ijuru, ngo ubutumwa bwiza buroranirwe, buvuzwe gusa n'imitima isusurutse, n'iminwa yakarihijwe n'ubumenyi buzima bwa wa wundi ari inzira, ukuri, n'ubugingo. Igikorwa cahawe abigishwa cari gikeneye inkomezi nyinshi; kuko imipfunda y'ikibi yo kukirwanya yari myinshi kandi ikaze. Umurongozi adahunyiza kandi w'inshigwarimenetse niwe yarongora inkomezi z'umwiza, kandi abakurikiye Kristo bashobora kurwanira ukuri bishimikije gusa ubufasha Imana izobaha, biciye muri Mpwemu wiwe.

Kristo yabwiye intumwa ziwe ko zategerezwa gutangurira igikorwa cabo i Yerusalemu. Ico gisagara cari ciboneye n'amaso yaco ingene Kristo yitanze ku bwa kiremwa muntu. Aho niho, yambaye umubiri w'umuntu, yagendagenda, akaganira n'abantu, kandi bake baratahuye ingene ijuru ryiyegereje isi. Aho niho yari yaciriwe urubanza kandi akabambwa. Muri Yerusalemu, hariho abantu bizera mu mpisho ko Yesu w'i Nazareti ari Mesiya, n'abandi benshi bari bahenzwe n'abaherezi hamwe n'abategetsi. N'abo nyene nabo bategerezwa kubwirwa ubutumwa bwiza. Bategerezwa guterwa akamo ngo bihane. Ukuri gutangaje kuvuga ko muri Kristo honyene ari ho hari ukubabarirwa ivyaha, kwategerezwa kuvugwa mu buryo butomoye. Kandi igihe Yerusalemu yose yari ikiri mu gahundwe kubera ibintu vy'agahomerabunwa vyari vyahakorewe mu misi ishize, niho inyigisho z'abigishwa zashobora gukora cane ku mitima.

Mu misi Yesu yarangura igikorwa ciwe, yakomeje kubwira abigishwa biwe ko bategerezwa kuba umwe nawe mu gikorwa co gukura isi mu buja bw'icaha. Igihe yarungika bamwe Cumi na babiri, hanyuma akarungika bamwe mirongo irindwi, ngo bamamaze ubwami bw'Imana, yariko arabigisha igikorwa cabo co gushikiriza abandi ico yari yabamenyesheje. Mu gikorwa ciwe cose yakoia yariko arabigisha ingene bokora umwe umwe wese ku giti ciwe, n'uko bazokwagura igikorwa uko igitigiri cabo kizokwongerekana, mbere kumbure bagashika no mu bice vya kure vy'isi. Icigwa ca nyuma yahaye abigishwa biwe cari ko babikijwe inkuru nziza z'agakiza ngo bazishikirize isi.

Igihe gishitse ngo Kristo aduge kwa Se, yajanye intumwa ziwe i Betaniya. Bahageze, yararuhutse, hanyuma baramukikuza. Aramvura amaboko arabahezagira, bizigiye ko azokomeza kubazigama, abavamwo bukebuke araduga. «Akiba-

hezagira, atanclukanywa nabo aduzwa mw'ijuru.» Luka 24 :51. Igihe abigishwa bari bacangaje amaso mu kirere ngo babone ingene Umwami wabo aduga, yakiranywe umunezero n'abamarayika bo mw'ijuru. Uko abo bamarayika bamuherekeza mu birimba vyo mw'ijuru, bararirimvye indirimbo z'intsinzi: «Yemwe bihugu vy'abami bo mw'isi, ni muririmbire Imana; Niwe agendera kw'ijuru ryo hejuru y'amajuru yose... Mwaturire Imana ko ifise ubushobozi, ubwiza bwiwe buri hejuru y'Abisirayeli, ubushobozi bwiwe buri mu bicu.» Zaburi 68:32-34. Abigishwa bagihanze amaso mw'ijuru [17]
akigenda, «babona abagabo babiri bambaye impuzu zera bahagarara i ruhande yabo; barababaza, bati bagabo b'i Galilaya, n'iki gitumye muhagaze muraba mw'ijuru ? Uyo Yesu, abakuwemwo akaduzwa mw'ijuru, azoza atyo, nk'uko mumubonye aja mw'ijuru.» Ivyakozwe n'Intuinwa 1:10,11.

Isezerano ryo kugaruka kwa Kristo ryategerezwa kuguma mu bwenge bw'abigishwa biwe. Uwo Yesu bari babonye aduga mw'ijuru, azogaruka, ngo ajane iwe abo bari mw'isi bitanga ku bw'igikorwa ciwe. Rya jwi ryari ryarababwiye ngo «Ehe ndi kumwe namwe imisi yose gushika ku muhero w'isi,» rizobaha ikaze imbere yiwe mu bwami bwo mw'ijuru. Nk'uko mu mihango y'ingereranyo umuherezi mukuru yambura impuzu ziwe z'icubahiro agakora igikorwa yambaye impuzu yera y'umuherezi asanzwe; niko Kristo yiyambuye impuzu z'ubwami, maze yambara umubiri w'umuntu, atanga ikimazi, aba umuherezi kandi aba n'ikimazi.

Nk'uko umuherezi mukuru kandi, ahejeje igikorwa ciwe ahera cane, yasohoka akagaragara imbere y'abantu yambaye impuzu z'icubahiro; niko na Kristo azoza ubugira kabiri, yambaye impuzu zikayangana, zera derere, «kandi nta mumesuzi kw'isi yoshoboye kuzeza atyo.» Mariko 9 :3. Azoza mu bwiza bwiwe, no mu bwiza bwa Se, kandi ingabo zose z'abamarayika zizomuherekeza. Gutyo isezerano Kristo yasezeraniye abigishwa biwe rizoba risohoye, «Nzogaruka kubajana i wanje.» Yohana 14:3. Abamukunze kandi bakamwitegurira, azobambika ubwiza, n'icubahiro, n'ukudapfa. Abagororotsi bapfuye bazova mu mva zabo, abakiriho nabo bazoduganwa nabo gusanganira Umwami mu kirere. Bazokwumva ijwi rya Yesu, rihimbaye kuruta indirimbo iyo ari yo yose umuntu yigeze kwumva, ribabwira riti, intambara yanyu irarangiye. «Ni muze, abo Data yahezagiye, muragwe ubwami mwateguriwe, uhereyeku

kuremwa kw'isi.» Matayo 25 :34. Abigishwa bari bakwiye kunezerwa ku bw'ivyizigiro vyo kugaruka k'Umwami wabo.

## Ikigabane ca 4 : Pentekote

*Iki kigabane gishimikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 2:1-39.*

Uko abigishwa basubira i Yerusalemu bavuye ku musozi wa Elayono, abantu barabitegereje, biteze kubona mu maso yabo ibimenyetso vy'agahinda, kuzazanirwa n'ugutsindwa; ahubwo babonye akanyamuneza n'intsinzi. Abigishwa ntibagandaye ku bw'ivyizigiro bitabonye inyishu. Bari babonye Umukiza wabo yazutse, kandi amajambo y'isezerano ryiwe rya nyuma yaguma asamirana mu matwi yabo. Kubwo kwubaha itegeko rya Kristo, barindiririye i Yerusalemu isezerano rya Data- Gusukwa kwa Mp- [18]
wemu. Ntibarindiriye bareze amaboko. Ivyanditswe bivuga ko «bama mu rusengero ubudasiba bashima Imana.» Luka 24 :53. Barakoranira hamwe kandi ngo bashikirize ibibazo vyabo Data mw'izina rya Yesu. Bari bazi ko bafise uwubasereukira mw'ijuru, uwubaburanira imbere y'intebe y'Imana. Baraca bugufi mu gusenga, n'icubahiro cinshi, basubiramwo ivyizigiro: «Ico muzosaba Data cose, azokibaha mw'izina ryanje. Kugeza ubu ntaco mwasavye mw'izina ryanje: musabe

muzohabwa, ngo umunezero wanyu wuzuzwe.» Yohana 16:23, 24. Bakomeje kuramvura cane ikiganza c'ukwizera, bishimikije aya majambo : Ni Kristo Yesu, kandi niwe yapfuye, ibibiruta yarazutse, ari i buryo bw'Imana, bitayeko aradusengera.» Abaroma 8 : 34.

Uko abigishwa barindira ko iryo sezerano risohora, niko bicisha bugufi mu mitima bihana ata budyadya, kandi batura ukutizera kwabo. Bagerageje kwibuka amajambo Kristo yari yababwiye atarapfa, baratahuye neza ubusobanuro bwayo. Ukuri bari baribagiye kwongeye kugaruka mu bwenge bwabo, hanyuma barakwibutsanya. Baricuza impamvu batahuye Umukiza ukutari ko. Ubuzima bwiwe butangaje bwaca imbere yabo, ido n'ido, nk'urugendo. Uko biyumvira ku buzima bwiwe butagira akanenge, bwera, batahuye ko ata gikorwa na kimwe coba kiruhije, canke ukwitanga kwoba gukomeye, igihe gusa boshobora mu buzima bwabo gushingira in-

tahe ubutore bwa kamere ya Kristo. Bariyumvira bati, ese icoduha tukongera kubaho ya myaka itatu yaheze, twokwigenza ukundi! Icobaha bakongera kubona Umwigisha wabo, bokwihatira kumwereka urukundo bamukunda, n'ingene mu vy'ukuri batewe agahinda n'uko bamubabaje mu majambo canke mu bikorwa vyo kutizera ! Ariko batewe intege n'ukwumva ko bababariwe. N'uko bafata ingingo ko, bazokora uko bashoboye, ngo barihe ukutizera kwabo mu kumwemangira imbere y'isi.

Abigishwa barasenze bashimitse kugira ngo baboneke nk'ababereye imbere y'abantu bahura, kandi mu migenderanire yabo ya buri musi bagerageza kuvuga amajambo yoshobora kuzana abanyavyaha kuri Kristo. Bashize i ruhande ibibatandukanya vyose, ivyifuzo vyabo vyo kuba bakuru, bishira hamwe mu bucud bwa kivandimwe. Bakomeza kwiyegereza Imana. Gutyo rero batahura ko bari baronse amahirwe adasanzwe, mu kwemererwa kubana hafi na Kristo. Imitima yabo yuzuye akababaro bibutse ingene ibihe vyinshi bamubabaje kubwo kudatahura vuba kwabo, kudatahura ivyigwa yagerageje kubigisha ku bw'ineza yabo.

Iyo misi yo kwitegura yabaye imisi yo gusesangura mu mutima. Abigishwa baratahuye ubukene bwabo mu vya Mpwemu, niko gutakambira Umwami ngo abahe ugusigwa lcwera kwari kubashoboza gukora igikorwa co gukiza imitima. waro wo gukiza imitima. Baratahuye k'ubutumwa bwiza bwategerezwa kujanwa mw'isi. Niko gusaba rero ubushobozi Kristo yari yarabe-
[19] mereye. Mu gihe c'abakurambere, igikorwa ca Mpwemu rimwe na rimwe cari carahishuwe mu buryo bugaragara, ariko nta na rimwe vyabaye mu buryo bwuzuye. Ubu rero, kugira ngo bagamburukire ijambo ry'Umukiza, abigishwa baratakamvye ngo baronke iyo ngabire, Yesu nawe mw'ijuru yongerako amasengesho yiwe. Yarasavye iyo ngabire ya Mpwemu, kugira ngo ayisuke ku bantu biwe. «Umusi wa Pentekote ushitse, bose bari bakoraniye ahantu hamwe bafise umutima umwe. Haza igihinda kivuye mw'ijuru giturumbuka, nk'uguhuhuta kw'umuyaga w'inkomezi, gikwira hose mu nzu bicayemwo.»

Mpwemu yaje ku bigishwa bari barindiriye basenga, yuzuye ku buryo yashitse mu mutima wa buri wese. Isumba vyose yihishuriye ishengero ryayo mu bushobozi. Vyasa n'uko mu bihe vyashize ubwo bubasha bwari bwiyerekanye ku rugero ruto, ariko noneho

Ijuru ryanezerejwe no gushobora gusuka kw'ishengero ubutunzi bw'ubuntu bwa Mpwemu. Kandi ku bw'igikorwa ca Mpwemu, amajambo y'akababaro n'ukwatura yavanzwe n'indirimbo zo kuninahaza kubera kubabarirwa kw'ivyaha. Amajambo yo gushima n'ayo kuvugishwa yarumvikanye. Ijuru ryose uko ryakabaye ryarunamye ryihweza kandi rishima urukundo ntangere rurengeye ubwenge. Intumwa zaratangaye, zitera akamo ziti: «Uru ni urukundo koko.» Barakorakoze iyo ngabire yatanzwe. None hakurikiye iki ? Inkota ya Mpwemu, yanowe busha n'ubushobozi kandi yogejwe mu miravyo y'ijuru, yaratoboye inzira mu mitima itizera. Ibihumbi n'ibihumbi vyarihanye ku musi umwe.

Kristo yabwiye abigishwa biwe ati, «Ikizogira ico kibamarira, n'uko jewe ngenda.» ; Kuko ni ntagenda, Umwitsa ntazoza kuri mwebwe. Ariko ni nagenda nzomubarungikira.» «Ariko uwo Mpwemu w'ukuri ni yaza, azobarongora abashitse ku kuri kwose, kuko atazovuga ivyo yigeneye, ariko ivy'azokwumva vyose nivyo azovuga, kandi azobamenyesha ibigira bize.» Yohana 16:7,13. Kuduga kwa Kristo mw'ijuru kwabaye ikimenyetso ko abamukurikiye bagira baronke umugisha basezeraniwe. Bategerezwa kurindira uwo mugisha imbere y'uko binjira mu gikorwa cabo. Igihe Kristo yinjira mu marembo yo mw'ijuru, yimitswe hagati y'amasengesho y'aBamarayika. Buno nyene iyi nteguro iheze, Mpwemu Yera yaciye amanuka asukwa ku bigishwa, kandi Kristo yarahawe icubahiro, mbere nka ca cubahiro yari afise hamwe na Se ibihe bidashira. Gusukwa kwa Mpwemu ku musi wa Pentekote, kwari nk'uko ijuru ryari rivuze riti iyimikwa rya Kristo rirarangiye. Nk'uko yari yarabisezeranye, yarungitse ku bigishwa Mpwemu Yera avuye mw'ijuru, nk'ikimenyetso ko, nk'umuherezi n'umwami, yaronse ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi, kandi ko ari Uwarobanujwe amavuta ku bw'abantu biwe.

«Hababonekera ibirimi vyigabanije, nk'ivy'umuriro; bibazako umwe umwe. Bose buzuzwa Pwemu Yera, batangura kuvuga izindi indiini, uko Mpwemu abahaye kuzivuga.» Mpwemu Yera, [20] mw'ishusho y'indimi z'umuriro, yamanutse ku bari bakoranye. Ico cari ikimenyetso c'iyo ngabire abigishwa bari baronse, yabashoboje kuvuga ata ngorane indimi batari bwigere bavuga hambere. Ukuboneka kw'umuriro kwasobanura umwete intumwa zizokorana, n'ubushobozi buzobaherekeza mu gikorwa cabo. «I Yerusalemu

hari Abayuda bamyeho, abagabo bubaha Imana, bari baravuye mu mahanga yose yo musi y'ijuru. Igihe Abayuda bangazwa, basanzaye hafi muri buri gace ko kw'isi karimwo abantu, kandi mu buhungiro bari barize kuvuga indimi nyinshi. Benshi muri abo Bayuda bari i Yerusalemu kuri uwo musi, baje mu misi mikuru yariko irahabera. Buri rurimi ruzwi rwari rufise umuntu aruserukira muri abo bantu bakoranye. Indimi nyinshi zari kubera intambamyi kwamamaza ubutumwa bwiza; Niho rero Imana yakora igitangaza kugira akureho ingorane intumwa zari kugira. Mpwemu Yera yabakoreye ico batari kwishoboza mu buzima bwabo. Ubu rero barashobora kwamamaza ukuri mu bihugu vyo hanze, bavuga neza indimi z'abo bariko barakorera. Iyo ngabire y'igitangaza yari ikimenyamenya kw'isi ko igikorwa bashinzwe gukora cateweko igikumu n'Ijuru. Uhereye ico gihe abigishwa bavuga ururimi rutomoye, rworoshe, kandi rutagira amahinyu, haba mu rurimi kavukire canke ururimi mvamahanga. «Ico gihinda cumvikanye, hakorana abantu benshi, barajorerwa, kuko umuntu wese yumvise ururimi rw'i wabo baruvuga. Barumirwa bose, baratangara, bati Mbega aba bose bavuga si Abanyagalilaya ? Kandi n'iki gitumye twese tubumva bavuga indimi z'i wacu izo twavukanye ?»

Abaherezi n'abategetsti babonye ivyo bitangaza ishavu riraniga, ariko ntibashobora gushika ku cifuZo cabo c'ubunyamaswa, kubera batinya ko abanyagihugu bagumuka. Bari barishe Umunyanazareti; none raba abasuku biwe, Abanyagalilaya batize amashure, bavuga mu ndimi zose zibaho inkuru z'ubuzima bwiwe n'ibikorwa vyiwe. Abaherezi, bigira inama yo gusobanura ubushobozi bw'abigishwa mu buryo bwa kimuntu, bavuga ko bari baborewe kubera banyoye bakarenza urugero vino nshasha yateguwe ku bw'umusi mukuru. Bamwe mu banyagihugu b'ibijuju baherako bavyizera nk'ukuri, ariko abandi bafise ubwenge barahinyuye ko arl ikinyoma; kandi abumva izo ndimi zitandukanye barashinze intahe z'ingene abigishwa bazivuga neza ata gukekeranya.

Petero mu kwishura ico kirego yaberetse ko ivyo bitangaza ari ubuhanuzi bwa Yoweli busohoye, aho yavuga ko ubushobozi nk'ubwo buzoza ku bantu ngo bubashoboze gukora igikorwa kidasanzwe. «Yemwe Bayuda n'ab'i Yerusalemu mwese, ibi rvi mubimenye, kandi ni mwumvirize amajambo yanje. Aba ntibaborewe, nk'uko muvyiyumvira, kuko ubu ari isaha zitatu z'umusi, ariko

ivyo ni ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana Yoweli, ati bizoba mu [21] misi y'iherezo, niko Imana yagize, nzosuka Mpwemu wanje ku bari n'umubiri bose : kandi abahungu n'abakobwa banyu bazovugishwa nanje, n'imisore yanyu izobona ivyo yeretswe, n'abatama banyu bazorota inzozi. Mbere n'abagurano banje b'abahungu n'abakobwa muri iyo misi nzobasukako Mpwemu wanje, bavugishwe nanje.»

Petero yavuze yemanga n'ubushobozi, ashingira intahe urupfu n'izuka vya Kristo:«Yemwe bagabo b'Abisirayeli, nimwumve aya majambo: Yesu Umunyanazareti, umuntu Imana yashimagirije kuri mwebwe ibitangaza n'utwumiza n'ibimenyetso, ivyo Imana yamukoresheje hagati yanyu, nk'uko mubizi, ubwanyu: Uwo muntu... mwaramufashe, mumubambisha amaboko y abagarariji, muramwica. Arikw' Imana yaramuzuye, ibohoye ibise vy'urupfu: kuko bitashobotse ko rumugumya.»

Petero ntiyacishije mu kanwa ivyerekeye inyigisho za Kristo ngo ashigikire amajambo yiwe, kuko yari azi ko abo yabwira bazishizemwo nabi cane, ku buryo amajambo yiwe yari kugwa ku rutare. Ahubwo yababwiye ivya Dawidi, uwo Abayuda bemera nk'umwe wo mu bakurambere b'igihugu cabo. «Dawidi yavuze ivy'uwo, atinabonye Uhoraho imbere yanje imisi yose, kuko ari i buryo bwanje, ngo sinyiganyige. Nico gituma umutima wanje uhimbarwa, ururimi rwanje rukanezerwa, kandi n'umubiri wanje uzoruhukira mu vyizigiro; kuko utazoreka ubugingo bwanje ngo buje i kuzimu, kandi ntuzotanga Uwera wawe ngo aze abore...

Bagabo bene Data, si ikingora kubabarira mvyeruye ivya sogokuruza mukuru Dawidi, yuko yapfuye, agahambwa, n'imva yiwe iri ngaha ino muri twebwe na bugingo n'ubu.» «Yavuze... ivyo ukuzuka kwa Kristo abibonye bitari bwabe, yuko atarekewe mu kuzimu, kandi n'umubiri wiwe ataho wigeze ubora. Uwo Yesu Imana yaramuzuye, natwe twese turi ivyabona vyo gushingira intahe ivyo.» Ivyo vyari ibintu biteye igomwe. Ehe nawe abantu bavuye mu mihingo yose y'isi kwumviriza ingene abigishwa bashingira intahe ukuri nk'uko nyene kuri muri Yesu. Barihuta baca hagati y'abantu binjira mu rusengero. Abaherezi n'abategetsi bari aho, n'ishavu ryabo ry'inyamaswa rikigaragara ku maso yabo, imitima yabo icuzuye urwanko banka Kristo, intoke zabo zitarakaraba amaraso basheshe igihe babamba Umukiza w'isi. Bibaza ko basanga intumwa zifise ubwoba ku bw'agahahazo n'ubwicanyi, ahubwo

basanga nta bwoba bafise kandi buzuye Mpwemu, batangaza n'ubushobozi ko Yesu Umunyanazareti ari Imana. Bumva bavugana ubushizi bw'amanga ko Uwo baherutse gusuzugura, bakamucokora, bakamukubitisha iminwe y'abicanyi, bakamubamba, ari Umwami w'ubugingo, ubu yahawe icubahiro i buryo bw'i Mana.

[22] Bamwe mu bumvirije intumwa bari mu bari bagize uruhara rukomeye mu gucira urubanza no kwica Kristo. Amajwi yabo yari yafatanije n'abanyagihugu mu gusemerera ngo n'abambwe. Igihe Vesu na Baraba bahagarara imbere yabo mu rubanza hanyuma Pilato akabaza ati, «Uwo mugomba ko ndabarekurira ninde ?» basemereye ngo, «si uyu Mugabo, ahubwo turekurire Baraba !» Matayo 27 :17; Yohana 18 :40. Igihe Pilato yabahereza Kristo ngo abambwe, avuga ngo, «Ni mube ari mwebwe mumwishorera mumubambe : kuko jewe nta gicumuro mbonye kuri we;» «Jeho ndacuna ku bw'amaraso y'uyu mugororotsi,» basemereye ngo, «amaraso yiwe araba ari twebwe akora n'abana bacu.» Yohana 19 :6; Matayo 27 :24,25.

Noneho bumva abigishwa bemanga ko uwo babamvye yari Umwana w'Imana. Abaherezi n'abategetsi baranyuzwe kandi bicwa n'agahinda. «Bibacumita mu mitima, babaza Petero n'izindi ntumwa, bati Bagabo bene Data, mbega tugire dute ?» Muri abo bumvirije abigishwa harimwo abayuda b'umutima, batagira uburyarya mu kwizera kwabo. Ubushobozi bwaherekeza amajambo yiwe bubemeza ko Yesu vy'ukuri yari Mesiya. «Petero arabishura, ati ni mwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwe ingabire ya Mpwemu Yera. Kuko isezerano ari iryanyu kandi ari iry'abana banyu, n'abari kure bose, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu.»

Petero yatashe yemeje abantu ko banse Kristo kubera bahenzwe n'abaherezi n'abategetsi; kandi ko nibakomeza gusaba inama abo bantu, bakababahanga amaso kugira bemere Kristo, batazokwigera bamwakira. Abo bagabo b'ubushobozi, n'aho bigira abubaha Imana, bari batwawe umutima n'amaronko y'isi, n'icubahiro. Ntibashaka kuza kuri Kristo ngo bakire umuco. Ku bwo kumurikirwa n'uwo muco ukomoka mw'ijuru, Ivyanditswe Kristo yari yarasiguriye abigishwa vyagaragaye ko ari ukuri kutagabanije. Igihuzu cari cabakingiriye ngo ntibabone ku mpera y'ivyari

vyarakuweho, noneho cari kihavuye, niko gutahura neza intumbero y'icari cazanye Kristo, n'ubwoko bw'ubwami bwiwe. Bashobora kuvugana ubushobozi bw'Umukiza; kandi uko bahishurira ababumviriza umugambi w'agakiza, benshi baranyuzwe kandi baremera. Imigenzo n'ibintazi bari bigishijwe n'abaherezi vyahanaguwe mu bwenge bwabo, inyigisho z'Umukiza nazo zirakirwa. «N'uko abemeye amajambo yiwe barabatizwa: abongewe kuri uwo musi ku bari basanzweho bari nk'ibihumbi bitatu.» Abategetsi b'Abayuda bari bibwiye ko igikorwa ca Kristo kizoherana n'urupfu rwiwe; ahubwo, bibonera n'amaso yabo ibitangaza vyo ku musi wa Pentekote. Barumvise abigishwa, buzuye ubushobozi n'inkomezi batigeze babona, bamamaza Kristo, amajambo yabo ashigikiwe n'ibimenyetso hamwe n'ibitangaza. Muri Yerusalemu, yari intamenwa y'idini y'Abayuda, ibihumbi n'ibihumbi bavuga ku mugaragaro ko bizeye Kristo Umunyanazareti nka Mesiya. Abigishwa baratangaye kandi akanyamuneza karabasya ku bw'umwimbu uhambaye w'imitima. Ntibaravye uwo mwimbu utangaje nk'icavuye mu vyuya vyabo ; batahuye ko bariko barinjira mu gikorwa c'abandi bantu. Uhereye igihe Adamu yagwa, Kristo yari yarahaye abashumba yitoranirije imbuto y'ijambo ryiwe, ngo ibibwe mu mitima. Igihe yari kw'isi, yari yarabivye imbuto y'ukuri, kandi ayivomereza amaraso yiwe. Abantu bahindutse ku musi wa Pentekote bari igikorwa c'iyo mbuto yabibwe, umwimbu w'igikorwa ca Kristo, kigaragaza ubushobozi bw'inyigisho yiwe. [23]

Amajambo y'intumwa yonyene, n'aho yari atomoye kandi y'ububasha, ntiyari gukura ivyiyumviro bigoramye vyari vyarananiranye n'aho hari ivyemezo bigaragara. Ariko Mpwemu Yera yarungitse ivyiyumviro bifise ubushobozi bw'Imana mu mitima yabo. Amajambo y'intumwa yari asongoye nk'imyampi y'Ishoboravyose, yemeza abantu icaha bakoze mu kwanka kwakira no mu kubamba Umwami w'icubahiro.

Inyigisho za Kristo zari zafashije abigishwa gutahura ko bakeneye Mpwemu. Mpwemu abigishije baronse ubushobozi bwa nyuma, hanyuma batangura igikorwa cabo bakoze ubuzima bwabo bwose. Ntibongeye kugaragara nk'ibijuju canke nk'abatize amashure. Ntibongeye kuba nk'ihwaniro ry'uturwi tw'utudumbidumbi twigenga. Ivyizigiro vyabo ntivyongeye kuba ku bukuru bw'isi. Bari «n'umutima uhuye,» «bahuje umutima

n'inama.» Ivyakozwe n'Intumwa 2 :46; 4 :32. Kristo yuzuye ivyiyumviro vyabo ; Guteza imbere ubwami bwiwe nico cabaraza ishinga. Mu bwenge no muri kamere, bari bahindutse nk'Umwigisha wabo, kandi abantu, «bamenya ko babana na Yesu.» Ivyakozwe n'Intumwa 4 :13.

Pentekote yabazaniye umuco w'ijuru. Ukuri batashobora gutahura igihe Kristo yari kumwe nabo kwaciye noneho guhishurwa. Bakiriye inyigisho z'Ijambo Ryera bafise ukwizera n'ubushizi bw'amanga batigeze bagira. Ntibongeye gukekeranya ko Kristo yari Umwana w Imana. Batahuye ko, n'aho yari yambaye umubiri w'umuntu, vy'ukuri yari wa wundi Mesiya, kandi babwira amahanga yose ivyababayeko badakekeranya, ku buryo ivyo vyabaye icemezo ko Imana yari kumwe nabo. Bashobora kuvuga izina rya Yesu bemanga; kukaba nka ko, mbega nti yari Umukunzi kandi akaba Mukuru wabo ? Binjizwe mu bumwe hamwe na Kristo, bicaranye na We mu bibanza vyo mw'ijuru. Ntiworaba ingene barurumba bamushingira intahe! Imitima yabo yari yuzuye ukwitanga kwuzuye, kwimbitse, kutagira imbibe, kwatumye bashika ku mpera y'isi, bashingira intahe ubushobozi bwa Kristo. Bari buzuye igishika co gushishikara igikorwa yari yaratanguye. Batahuye uburemere bw'umwenda bafitiye ijuru, n'umutwaro w'igikorwa cabo. Mu nkomezi za Mpwemu Yera, bagenda buzuye ubwira bwo kwagura
[24] intsinzi y'umusaraba. Mpwemu yarabakoresha kandi akabavugiramwo. Amahoro ya Kristo yakayangana mu maso yabo. Bari barihebeye igikorwa ciwe, kandi no mu maso habo haragaragaza ukwitanga kwabo.

# Ikigabane ca 5: Ingabire Ya Mpwemu

Igihe Kristo yaha abigishwa biwe isezerano rya Mpwemu, yari yegereje kurangiza igikorwa ciwe kw'isi. Yari yicaye mu gitutu c'umusaraba, urangiza umutwaro w'icaha categerezwa kumugwako nk'Uwiremeka ivyaha. Imbere yo kwitanga nk'ikimazi, yabwiye abigishwa biwe ivyerekeye ingabire ikenewe kandi yuzuye kuruta izindi yari agiye guha abiwe bamukurikiye-Ingabire yobazaniye ubutunzi butagira akagero. «Nanje nzosaba Data,» niko yababwiye, «Nawe azobaha uwundi Mwitsa, ngo aze abane namwe ibihe bidashira, niwe Mpwemu w'ukuri, uwo ab'isi badashobora kwakira, kuko batamubona, kandi batamuzi; Mweho muramuzi, kuko abana namwe kandi azoba muri mwebwe.» Yohana 14 :16, 17. Yesu yerekeza ivyiyumviro ku gihe Mpwemu azozira gukora igikorwa gikomeye, nk'icariho ciwe. Ikibi cari caragwiriranye mu binjana vyinshi, categerezwa kurwanywa n'ubushobozi bw'Imana bwa Mpwemu Yera.

Ni iyihe yabaye inkurikizi y'ugusukwa kwa Mpwemu ku musi wa Pentekote ? Inkuru nziza yashitse mu turere twa kure tw'isi iriko abantu. Ubwo abigishwa bamamaza ubutumwa bw'ubuntu bwo gucungura, imitima yaraciye bugufi imbere y'ubushobozi bw'ubwo butumwa. Ishengero ryabonye abantu bahindukiriye Imana baseseka bava mu mihingo yose. Abari barataye ukwizera barongeye guhindukirira Imana. Abanyavyaha bifatanije n'abizera mu kurondera imaragarita y'agaciro kanini. Bamwe mu bari barigize abahizi mu kurwanya ubutumwa bwiza bahindutse abahizi mu kubushigikira. Ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana vyarasohoye, «Umunyantege nke... azomera nka Dawidi; kandi inzu ya Dawidi... nk'umumarayika w'Uhoraho.» Zekariya 12 :8. Umukristo wese yabonye muri mwene Se uguhishurwa kw'urukundo rw'Imana n'ukwitanga. Inyungu imwe niyo yashirwa imbere; ico bose bahiganirwa cari kimwe. Icaraza ishinga abizera kwari kugaragaza ugusa na kamere ya Kristo, n'ugukora ngo bagure ubwami bwiwe.

«Intumwa zashingira intahe ukuzuka kw'Umwami Yesu ziri n'ubushobozi bwinshi: kandi ubuntu bw'Imana bwinshi buba kuri bose.» Ivyakozwe n'Intumwa 4:33. Ku bw'ibikorwa vyabo abantu barobanuwe biyongeye kw'ishengero, abantu, baronse ijambo ry'ukuri, bagahebera ubuzima bwabo igikorwa co guha abandi ivyizigiro vyujuje imitima yabo amahoro n'akanyamuneza. Ntibashobora gusubizwa inyuma, canke guterwa ubwoba. Umwami y&bavugiyemwo, kandi ubwo bagenda hirya na hino, aboro
[25] barumvise ubutumwa, n'ibitangaza vy'ubuntu bw'Imana vyarakoretse. Imana ishobora gukora ibikomeye igihe abantu bitanze ngo bayoborwe na Mpwemu wayo.

Isezerano rya Mpwemu Yera ntirigarukira ku runganwe runaka canke ku bwoko runaka. Kristo yavuze ko igikorwa ca Mpwemu wiwe kizobana n'abamwizeye gushika ku muhero w'isi. Uhereye ku musi wa Pentekote gushika n'uyu musi, Umwitsa yarvmgitswe kuri abo bose bihaye burimdu Umwami n'igikorwa ciwe. Kuri abo bose bakiriye Kristo nk'Umukiza wabo bwite, Mpwemu Yera yabajeko nk'Umujanama, uweza, umurongozi, n'icabona. Uko abizera bagiye bagendana n'Imana, niko bagiye bagaragaza neza n'inkomezi urukundo bakunda Umukiza wabo n'ubuntu bwiwe bukiza. Abagabo n'abagore banezerejwe cane no kubana na Mpwemu mu binjana vy'agahamo n'amageragezwa, bahagaze bameze nk'ibimenyetso n'ibitangaza mw'isi. Imbere y'abamarayika n'imbere y'abantu, bahishuye ubushobozi buhindura bw'urukundo rukiza.

Abo ku musi wa Pentekote buzuye ubushobozi buva hejuru, ntibaciye bakingirwa ibigeragezo n'imibabaro. Ubwo bashingira intahe ukuri n'ukugororoka, ni ko bakomeza guhura n'intambamyi z'umwansi w'ukuri kwose, ashaka kubavana mu bukristo bwabo. Bategerezwa kurwana n'inkomezi zose Imana yabahaye kugira bashikire urugero rw'igihagararo rw'abagabo n'abagore bari muri Kristo Yesu. Buri musi basenga ngo baronke ubuntu bushasha, kugira bakomeze kuduga hejuru cane bagana ku bugororotsi. Ku bw'igikorwa ca Mpwemu Yera, n'umunyantege nke, akoresheje ukwizera Imana, yize guteza imbere inkomezi yahawe, hanyuma ashikira ukwezwa, no guhingurwa, no kuba intore. Ubwo bicishije bugufi ngo bayoborwe n'igikorwa ca Mpwemu Yera gihindura, bahawe ivyuzuye biva ku Mana, bahingurwa mw'ishusho y'Imana. Uwo mwanya waciye hagati nta co wahinduye kw'isezerano rya

Kristo ryo gutanga Mpwemu Yera nk'icariho ciwe. Imana si yo ibuza ubutunzi bw'ubuntu bwayo gusesekara ku bantu hano kw'isi. Namba isezerano ridasohora nk'uko ryategerezwa, ni uko iyo ngabire idashimwa nk'uko yategerezwa. Iyo aba bose babishaka, bose bokwujujwe Mpwemu. Aho hose abantu bumva gake ko bakeneye Mpwemu Yera, haboneka ubugaragwa mu vya Mpwemu, umwiza mu vya Mpwemu, ugusubira inyuma mu vya Mpwemu, n'urupfu. Igihe cose utuntu dutoduto twitwararikwa, ubushobozi bw'Imana bukenewe ngo ishengero rikure kandi riroranirwe, kandi bwozanira bose imigisha, burabura, n'aho butangwa bunengeseye.

Kubera ko iyi ari yo nzira turonkeramwo ubushobozi, kuki tutagira inzara n'inyota yo kuronka ingabire ya Mpwemu ? Kuki tutaganira ivy'iyo ngabire, ngo tuyisabe, ngo dusigure ivyerekeye iyo ngabire ? Umwami yifuza guha ingabire ya Mpwemu Yera abamukorera, kuruta uko abavyeyi baha abana babo ibintu vyiza. Umukozi wese ategerezwa gusaba Imana ngo imuhe umubatizo [26]
wa Mpwemu buri musi. Imirwi y'abakozi b'Abakristo yari ikwiye gukorana ngo basabe ubufasha budasanzwe, ngo baronke ubwenge bwo mw'ijuru, kugira bamenye ingene bategura imigambi n'ingene boyishirana mu ngiro ubwenge. Cane cane bari bakwiye gusenga ngo Imana ibatirishe urugero runini rw'ubutunzi bwa Mpwemu Yera ivyariho vyayo yatoye ikarungika mu mirima. Mpwemu ari kumwe n'abakozi b'Imana azobafasha kwamamaza ukuri n'ubushobozi, iteka n'icubahiro vy'isi bitoshobora gutanga.

Mpwemu Yera w'Imana ari kumwe n'umukozi w'Imana yitanze, aho yoba ari hose. Amajambo abwirwa abigishwa natwe turayabwirwa. Umwitsa ni Uwabo nk'uko ari Uwacu. Mpwemu atanga inkomezi zishigikira imitima iri mu kigoro n'intambara mu bihe ivyo ari vyo vyose, muri iyi si yuzuye urwanko, imitima igwa ikavyuka, iharamra guhishurirwa amakosa yayo hammwe n'aho igenda itsindwa. Mu gahinda no mu mibabaro, igihe hasa nk'uko ata vyizigiro, kandi kazoza kakatuzazanira, hanyuma tukigunga,-ibi nivyo bihe, Mpwemu Yera atwirura mu mutima, mu kwishura isengesho ry'ukwizera.

Si ikimenyetso gikwiye kuvuga ko umuntu ari Umukristo kubera yitereye hejuru ku bw'umunezero muri Mpwemu mu bihe bidasanzwe. Ubweranda si ukwiterera hejuru: ni ukwitanga wese ngo Imana igukoreshe ivyo ishaka; ni ukubeshwaho na buri jambo

riva mu kanwa k'Imana ; ni ugukora ugushaka kwa Data wo mw'ijuru ; ni ukwizera Imana mu mageragezwa mu mwiza no mu muco; ni ukubonesha ukwizera hakubonesha amaso; ni ukwumira ku Mana ukayizigira udakekeranya; n'ukwama mu rukundo rwayo. Ntibikenewe cane kuri twebwe gushobora gusobanura neza ico ari co Mpwemu Yera. Kristo atubwira ko Mpwemu Yera ari Umwitsa, «Mpwemu w'ukuri ava kuri Data.» Biravugwa neza ko, Mpwemu Yera, mu gikorwa ciwe co kurongora abantu mu kuri kwose, «atazovuga ivyiwe.» Yohana 15 :26 ; 16 :13.

Kamere ya Mpwemu Yera ni amayobera. Abantu ntibashobora kubisobanura, kuko Umwami atabibahishuriye. Abantu bafise ivyiyumviro bihanitse, bashobora gutororokanya imirongo ya Bibiliya hanyuma bakayiha ishusho biyumviriye, ariko kwakira ivyo vyiyumviro ntibizokomeza ishengero. Ku vyerekeye aya mabanga agoye cane gutahurwa n'abantu, vyoba vyiza bacecetse. Igikorwa ca Mpwemu Yera kirerekanwa neza mu majambo ya Kristo: «Uwo ni yaza, azohinyuza ab'isi, abemeze ivy'icaha, n'ivy'ukugororoka, n'ivy'amateka.» Yohana 16 :8. Mpwemu Yera niwe atwemeza icaha. Iyo umunyavyaha yumviye igikorwa co kugobera ca Mpwemu, azoshikanwa ku kwihana n'ugutahura akamaro ko kwumvira ivyo Imana itegeka. Ku munyavyaha yihanye, akagira inzara n'inyota y'ubugororotsi, Mpwemu Yera ahishura Umwagazi w'Intama w'Imana akura icaha c'isi. «Azokwakira ku
[27] vyanje, abibamenyeshe,» niko Kristo yavuze. «Azobigisha vyose, kandi azobibutsa ivyo nababariye vyose.» Yohana 16 :1; 14 :26.

Mpwemu Yera atangwa nk'igikoresho gihindura, mu gushira mu ngiro agakiza kazanywe n'urupfu rw'Umucunguzi. Mpwemu Yera yama na ntaryo agerageza kwereka abantu ishikanwa rihambaye ryatanzwe ku musaraba i Caluvari, ngo ahishurire isi urukundo rw'Imana, no kwugururira umutima wanyuzwe ibintu vy'agaciro vyo mu Vyanditswe Vyera. Amaze kwemeza icaha, n'ukwereka umuntu urugero rw'ubugororotsi, Mpwemu Yera aca akura ivyifuzo ku bintu vy'isi, akuzuza umutima icifuzo c'ubweranda. «Azobarongora mu kuri kwose,» (Yohana 16 .13) niko Umukiza yavuze. Iyo abantu bemeye guhingurwa, bazoronka ukwezwa kw'ubugingo bwose. Mpwemu azofata ibintu vy'Imana, abibohere ku mutima. Ku bw'ubushobozi inzira y'ubuzima izogaragara neza ku buryo ata muntu yoshobora kuzimagirika muri yo.

Uhereye mbere na mbere, Imana yamye ikoresha Mpwemu Yera wayo, ibicishije mu bikoresho vy'abantu, ngo ishitse umugambi wayo ku bw'abantu baguye. Ibi vyagaragaye mu buzima bw'abakurambere. No kw'ishengero ryo mu bugaragwa, mu gihe ca Mose, Imana yamuhaye «Mpwemu wiwe mwiza ngo abahe ubwenge.» Nehemiya 9 :20. Kandi no mu misi y'intumwa Yakoreye ishengero ryayo ikoresheje Mpwemu Yera. Ubwo bubasha bwashigikiye abakurambere, bwahaye Kalebu na Yoshuwa ukwizera n'ubushizi bw'amanga, kandi bugatuma igikorwa c'intumwa gishikama, bwahangaje intahemuka z'Imana mu bihe vyose vyo kuroranirwa. Ni mu bushobozi bwa Mpwemu Yera Abakristo b'Abawaldensi mu Gihe c'Umwiza, bafashije gutegurira inzira Ubugorozi. Ni ubwo bushobozi kandi bwatumye utwigoro tw'abagabo n'abagore b'umutima tugira ico dushitseko, bituma inzira iboneka ngo abantu ba mbere batangure igikorwa co gutwara ubutumwa mu bihugu vyose, n'uguhindura Bibiliya mu ndimi z'amahanga yose n'amoko yose.

Kandi n'ubu Imana iracakoresha ishengero ryayo mu kumenyekanisha umugambi wayo kw'isi. Uyu musi intumwa z'umusaraba ziva mu gisagara zikaja mu kindi, igihugu mu kindi, zitegurira inzira ukugaruka kwa Kristo. Ibendera y'itegeko ry'Imana ririko rirashirwa hejuru. Mpwemu w'Inyabushobozi ariko arakabakaba mu mitima y'abantu, kandi abumvira igikorwa ciwe bahinduka ivyabona vy'Imana n'ukuri kwayo. Mu bibanza vyinshi, abagabo n'abagore bashobora kuboneka bashikanira abandi umuco wagaragaje inzira y'agakiza kava muri Kristo. Kandi uko bakomeza kureka ngo umuco wabo ukayangane, nk'uko ababatijwe na Mpwemu ku musi wa Pentekote babikoze, bakomeza kuronka umuco munini w'ubushobozi bwa Mpwemu. Gutyo, isi itegerezwa kumurikirwa n'ubwiza bw'Imana. Ku rundi ruhande naho, hariho bamwe, mu gishingo co gukoresha akaryo bafise muri iki gihe, biyicariye [28]
barindira ibihe bidasanzwe vy'impemburo, bizotuma ububasha bwabo bwo kumurikira abandi bwongerekana cane. Birengagiza ibikorwa bahawe muri iki gihe n'amahirwe bafise, bakareka umuco wabo ukazima, bakirindiriye igihe kizoza, aho, batagize akigoro na gato, bazoba ibikoresho vyo kwakira umuhezagiro udasanzwe, uzobahindura ukababashisha gukora igikorwa.

Ni ivyo ukuri ko mu gihe c'imperuka, igikorwa c'Imana kw'isi kigira kirangire, utwigoro tw'abizera barongowe na Mpwemu Yera, tuzoherekezwa n'ibimenyetso vy'ugushimwa n'Imana. Mu kimenyetso c'imvura y'agatasi n'iy'urushana, yagwa mu bihugu vy'Ubuseruko mu gihe c'irima n'igihe c'iyimbura, abavugishwa n'Imana b'Abaheburayo babonye imbere y'igihe gusukwa kw'ubuntu budasanzwe bwa Mpwemu kw'ishengero ry'Imana, ku rugero rutangaje. Gusukwa kwa Mpwemu mu bihe vy'intumwa yari intango y'imvura y'agatasi, canke imvura ya mbere, kandi inkurikizi yayo yabaye igitangaza. Ku mpera y'igihe, Mpwemu ategerezwa kuba mw'ishengero ry'ukuri.

Ariko isarura ry'isi ni ryegereza, ubuntu bwa Mpwemu bwarasezeranywe ngo butegure ishengero ku kugaruka kw'Umwana w'Umuntu. Uku gusukwa kwa Mpwemu kugereranywa n'imvura y'urushana; kandi Abakristo bategerezwa gusaba ubu bushobozi ku Mwami nyene iyimbura, «mu gihe c'imvura y'urushana.» Mu kubishura, «Uhoraho azorema imiravyo, maze azobaha imigezi y'imvura.»» Azomanura... imvura, imvura y'agatasi, n'imvura y'urushana.» Zekariya 10:1; Yoweli 2:23. Ariko abagize ishengero ry'Imana uyu musi, nibatifatanya n'isoko ryo gukura mu vya Mpwemu, ntibazosangwa biteguriye igihe c'iyimbura. Ni batategura amatara yabo kandi ngo yame yaka, ntibazoshobora guhabwa ubundi buntu mu gihe c'ubukene budasanzwe.

Abo bama bakira ubuntu busha, nibo bonyene bazoronka ubushobozi bungana n'ivyo bakeneye buri musi, n'ububasha bwo gukoresha ubwo bushobozi. Aho kurindira igihe kizoza, aho, mu bushobozi budasanzwe bwa Mpwemu, bazoronka ibitangaza bibashoboza kuzana imitima, bishira mu maboko y'Imana buri musi, ngo ibagire ibikoresho biberanye n'igikorwa c'Imana. Buri musi bateza imbere uburyo bwo gukora igikorwa kiri mu maboko yabo. Buri musi bama bariko barashingira intahe Umwigisha aho boba hose, haba ahantu hagayitse h'igikorwa co mu rugo, canke mu gikorwa c'ahagaragara.

Ku bihebeye igikorwa c'Imana, hari amajambo y'ihumure mu kumenya ko na Kristo nawe nyene, igihe yari mw'isi, yama buri musi asaba Se ubuntu busha bukenewe; hanyuma muri ubwo bumwe bwiwe n'Imana, yagenda gukomeza abandi n'ukubahezagira. Raba
[29] Umwana w'Imana yunamye atakambira Se! Naho ari Umwana

w'Imana, akomeresha ukwizera kwiwe amasengesho, kandi mu kwomatana n'ijuru, yikoranirizako ubushobozi bwo kurwanya ikibi, n'ugufasha abandi mu bukene bwabo. Nka Mukuru w'ubwoko bwacu arazi ubukene bw'abo, abageramiwe n'ubumuga kandi baba mw'isi y'icaha, n'ibigeragezo, bacifuza kumukorera. Arazi ko intumwa abona ko zibereye gutumwa, ari abantu bafise intege nke, bazimira; ariko, abo bose bitanga burundu ku bw'igikorwa ciwe, yabasezeraniye ubufasha buva ku Mana. Akarorero kiwe bwite ni ikimenyamenya ko gutakambira Imana twizeye-ukwizera gutuma umuntu yiyegurira Imana, n'ukwihebera igikorwa ciwe-bizozanira abantu ubufasha bwa Mpwemu Yera bwo kurwana n'icaha.

Umukozi wese akurikira akarorero ka Kristo azoba yiteguye kwakira n'ugukoresha ubushobozi Imana yasezeraniye ishengero ryiwe kugira ngo imirima yere ku bw'iyimbura ry'isi. Buri gitondo, uko intumwa z'ubutumwa bwiza zifukama imbere y'Uhoraho kandi zikavugurura amasezerano yabo yo kumwihebera, ni ko azobaha kubana na Mpwemu Yera wiwe, w'ubushobozi bwo kuvugurura no kweza. Uko bakomeza ibikorwa vyabo vya buri musi, bamenya ko Mpwemu Yera ataboneka, abafasha «kuba abakozi hamwe n'Imana.»

## Ikigabane ca 6: Kw'irembo Ry' Urusengero

*Iki kigabane gishimikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 3; 4:1-31.*

Abigishwa ba Kristo bariyumvamwo ko hari ivyo bahajije, hanyuma, mu kwicisha bugufi no mu gusenga, bafatanya intege nke zabo n'inkomezi ziwe, ukutamenya kwabo bagufatanya n'ubwenge bwiwe, kuba abatabereye babifatanya n'ubugororotsi bwiwe, ubworo bwabo babufatanya n'ubutunzi bwiwe butagira urugero. Muri izo nkomezi n'ubumenyi, ntibakekeranije mu gutera baja imbere mu gikorwa c'Umwigisha.

Inyuma gato Mpwemu Yera amaze kumanuka, kandi bamaze gusenga bashimitse, Petero na Yohana, bariko baraduga bagana ku rusengero gusenga, babonye kw'irembo ry'urusengero ryitwa Ryiza ikimuga, gifise imyaka mirongo ine, kuva akivuka, yamanye imibabaro n'ubumuga. Uwo muntu w'amahirwe make yari yarifuje kubona Yesu, ngo abone gukira; ariko yasa n'uwihebuye, kandi yaba kure y'ibikorwa vy'Uwo Muganga Karuhariwe. Ku bwo gutakamba kwiwe, vyaratevye bamwe mu bagenzi biwe bemera kumuzana kw'irembo ry'urusengero, ariko ahashitse asanga uwo yari yashizeko ivyizigiro bamwishe urwo agashinyaguro.

[30] Ukwihebura kwiwe kwateye akagongwe k'abari bazi igihe yamaze yizigiye ko Yesu yomukiza, niko ku muzana buri musi kw'irembo ry'urusengero, ngo abarengana bagire impuhwe bamuhe akantu gato ko guhumuriza ivyifuzo vyiwe. Petero na Yohana barenganye abasaba ubufasha. Abigishwa bamurabana impuhwe, hanyuma Petero avuga ati, «N'uturabe. Abashirako umutima agira ngo hari ico bamuha. Petero aramubarira, ati ifeza n'izahabu ntavyo mfise.» Ubwo Petero yemanga ubukene bwiwe, mu maso ha ca kimuga harirabur anirwa. Ariko ivyizigiro vyariyongeye iyo ntumwa ibandanije kuvuga, «Ariko ico mfise ndakiguha: Mw'izina rya Yesu Kristo w'i Nazareti, va hasi

utambuke.» Maze amufata ukuboko kw'i buryo, amukura hasi. Ako kanya nyene ibirenge vyiwe n'ingingo zavyo bica birakomera,

arabaduka arahagarara, atangura gutambuka, yinjirana na bo mu rusengero, atambuka yitera hejuru, ahimbaza Imana : abantu bose babona atambuka ahimbaza Imana, bamenya ko ko aro we yahora yicara kw'irembo ry'urusengero ryitwa Ryiza asegerereza; barumirwa cane, batangazwa n'ibimubayeko.»

«Ubwo uwo mugabo w'ikimuga yakize yari agifashe Petero na Yohana, abantu bose biruka kuri bo, bakoranira kw'ibaraza ryitwa irya Salomo, batangaye cane.» Batangajwe n'uko abigishwa bashobora gukora ibitangaza bisa n'ivyo Yesu yakoze. None raba uwo mugabo, yamaze imyaka mirongo ine ari ikimuga cihebuye, ubu akaba yigina kubera ko ashobora gukoresha ingingo ziwe zose, ata buribwe, kandi anezerewe no kwizera Yesu. Abigishwa babonye ingene abantu bajorewe, Petero arababaza ati, «Ni iki gitumye mutangazwa n'ibi ? Muduhangiye amaso iki, nk'aho ubushobozi bwacu canke ukwubaha Imana kwacu ari vyo vyaduhaye kumugendesha ?» Abemeza ko gukira kwabaye mw'izina no mu bikorwa vya Yesu w'i Nazareti, Uwo Imana yazuye mu bapfuye. lyo ntumwa ivuga iti, «Yizeye izina ry'uwo, iryo zina ryamuhaye inkomezi, uwo muzi kandi mubona : mbere ukwizera ahawe nawe, ni ko kumukirije rwose imbere yanyu mwese.»

Intumwa zavugiye ku mugaragaro icaha Abayuda bakoze mu kutakira nomu kwica Umwami w'ubugingo; ariko baririnze kubatera kwihebura. Petero yavuze ati, «Mwihakanye Uwera kandi Umugororotsi; «Kandi musaba ko babarekurira umwicanyi, wa Mwami w'ubugingo muramwica; ariko Imana imuzura mu bapfuye, natwe turi ivyabona vyo gushingira intahe ivyo.» «None rero Bene Data, ndazi yuko mwabikoze mutabizi, n'ababaganza nabo ni uko. Ariko, kuko ivyo Imana yavugiye mu kanwa k'abavugishwa nayo bose bitari bwabe, yuko Kristo Wayo azobabazwa, ivyo yabishikije ityo.» Yababwiye ko Mpwemu Yera ariko arabinginga ngo bihane
kandi bahindukire, yongera abemeza ko ata handi hari ivyizigiro [31]
vy'agakiza kiretse mu kigongwe c'Uwo babamvye. Mu kumwizera niho gusa ivyaha vyabo vyashobora guharirwa.

«Nuko mwihane, muhindukire,» asemerera ati, «Kugira ngo ivyaha vyanyu bihanagurwe; ibihe vyo guhembuka bibone ingene biza, bivuye mu nyonga z'Umwami Imana.» Namwe muri abana b'ababavugishwa n'Imana, kandi muri ab'isezerano Imana yasezeranye na basogokuruza banyu, ibwira Aburahamu, iti Mu ruvyaro

rwawe ni ho imiryango yose yo mw'isi izoherwa umugisha. Ni mwebwe Imana yatanguye gutumako Umushumba wayo imaze kumuzura, kugira ngo abe umugisha, abahindure, umuntu wese ave mu bibi vyiwe.» Abigishwa rero baramamaje izuka rya Kristo. Benshi mu babumvirije bari barindiriye iki gishingantahe, maze bacumvise, barizera. Vyabibukije amajambo Kristo yari yaravuze, baca bahitamwo kwifatanya n'abari barakiriye ubutumwa bwiza. Imbuto Umukiza yari yarabivye yarameze kandi yama ivyamwa. Abigishwa bakivugana n'abantu, «abaherezi bazanana aho bari n'umukuru w'abarinzi b'urusengero, n'Abasadukayo, bababajwe cane n'uko bigisha abantu, bababarira yuko ukuzuka kw'abapfuye kwabonetse kuri Yesu.»

Kristo amaze kuzuka, abaherezi bakwije kure na hafi ikinyoma ngo abigishwa bivye ikiziga ciwe igihe abarinzi b'Abaroma bari basinziriye. Ntibitangaje ko bashishwa no kwumva Petero na Yohana bamamaza izuka ry'Uwo bari bishe. Abasadukayo cane cane nibo bameze magabo. Bumvise ko inyigisho yabo nyamukuru igiye mu kaga, kandi ko abantu bagiye kubakurako icizere. Abahindukiriye uko kwizera gusha bakomeza kwiyongera, maze baba Abafarisayo canke Abasadukayo, bahuriza hamwe bati aba bigisha bashasha nitutabagenzura, ububasha bwacu buzogeramirwa kuruta igihe Yesu yari akiri kw'isi. Umukuru w'abarinzi b'urusengero nawe, afashijwe n'Abasadukayo bamwe, afata Petero na Yohana abaterera mw'ibohero, kuko bwari bumaze kugoroba, batagishobora kubacira urubanza.

Abansi b'abigishwa nta kundi bari kubigenza kiretse kwemera ko Kristo yazutse. Vyaragaragara ku buryo ata wari gukekeranya. Ariko, bakomantaje imitima yabo, banka kwihana ikibi c'ubuyobe bari barakoze mu kwica Yesu. Ivyemezo intumwa zatanga mu mvugo no mu ngiro bahumekewe vyari vyashikiye abategetsi b'Abayuda, ariko barikomantaza imitima, banka kwakira ubutumwa bw'ukuri. Kristo ntiyari yaje mu buryo bari biteze, kandi naho rimwe na rimwe bari bemeye ko yari Umwana w'Imana, barabirenzeko baramubamba. Ku bw'imbabazi zayo, Imana yakomeje kubaha ivyemezo, none raba, akandi karyo bahawe ko kuza kuri We karabonetse. Yarungitse abigishwa kubabwira ko bishe Umwami w'ubugingo, kandi muri ico kirego yarongeye ibahamagarira kwihana. Ariko kubera kwiremesha bibwira ko ari abagororotsi, abigisha b'Abayuda

baranse kwemera ko abo bantu babatunga agatoke ngo babamvye [32]
Kristo, bavuga barongowe na Mpwemu Yera.

Kubera ko biyemeje kurwanya Kristo, uko bakomantaza umutima, ni ko abo baherezi baronka inkomezi nsha zo kubandanya intumbero yabo. Ingingo yabo ikomeza kuba ntabanduka. Nti bisobanura ko batari kuva ku rizima, ahubwo ntibabishatse. Kuba bagirwa n'icaha kandi babereye upfa, kuba barishe Umwana w'Imana, si vyo vyonyene vyabatandukanije n'agakiza; ni uko biyemeje kurwanya Imana. Bakomeje kwanka kwakira umuco, kandi bazibiza ivyemezo vya Mpwemu. Ububasha butegeka abana b'umugararizo bwakoreye muri bo, bubarongora guhama abantu Imana yakoreramwo. Ubugome bwabo bwongerezwa n'ikintu cose bakora ngo barwanye Imana n'ubutumwa yari yahaye abashumba bayo ngo babwamamaze. Buri musi, uko banka kwihana, niko abarongozi b'Abayuda bagabitanya ukundi gusha, bakitegurira kwimbura ivyo babivye.

Uburake bw'Imana ntibuza ku banyavyaha banse kwihana ivyaha bakoze gusa, ariko ni kubera ko, igihe bahamagarirwa kwihana, babandanije gukomantaza umutima, basubira gukora ivyaha bari bakoze hambere aho, bakengera umuco bahawe. Iyo abarongozi b'Abayuda bumvira ubushobozi bwa Mpwemu Yera bubemeza icaha, bari kubabarirwa; ariko barinangiye umutima. Muri ubwo buryo, umunyavyaha, abandanije gukomantaza umutima, aba yishize aho Mpwemu Yera adashobora kumukorako. Umusi wakurikiye gukizwa kwa ca kimuga, Anasi na Kayafa, n'abandi banyacubahiro b'urusengero, barakoranye ngo bace urubanza, maze za mbohe zizanwa imbere yabo. Ni muri ico cumba nyene, n'imbere ya bamwe muri abo bagabo, Petero yari yihakanye Umwami wiwe mu buryo buteye isoni. Ivyo vyaciye biza mu mutima wiwe arengutse ngo nawe acibwe urubanza. Ico gihe yaboneyeho akaryo ko gucungura ivyo yakoze ku bwoba.

Abari aho bibutse uruhara Petero yari yagize mu rubanza rw'Umwigisha wiwe, baciye birya akara bibwira ko noneho aca aterwa ubwoba n'umunyororo n'urupfu. Ariko wa wundi Petero yihakanye Kristo mu gihe c'akaga, yahagaze ata bwoba, atandukanye cane na wa wundi Petero bari bazanye imbere y'urwego rukuru rw'ubucamanza. Uhereye ukugwa kwiwe yari yahindutse. Nti yari aciyernera canke yishira hejuru, ahubwo yariyorosha, kandi yuzuye Mpwemu Yera, kandi ku bwo gufashwa n'ubwo bushobozi, yiye-

meje kwiyambura ibara ry'ubuhakanyi bwiwe, mu gutera iteka izina yari yaratukishije. Kugeza ubu abaherezi bari birinze gucisha mu kanwa ivyo kubambwa no kuzuka vya Yesu. Ariko noneho, kugira bashike ku ntumbero yabo, vyabaye ngombwa ko babaza abo bagirizwa ingene uwo mugabo yakize ubumuga bwiwe. Barababaza bati, «Ni ubushobozi ki, canke n'izina ki, vyabateye gukora ivyo ?»

[33] Petero n'ubushizi bw'amanga bwera, afise n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera ababwira ata bwoba ati: «Nimumenye mwese, n'ubwoko bwose bw'Abisirayeli, yuko ari mw'izina rya Yesu Umunyanazareti, Uwo mwebwe mwabamvye, Imana ikamuzura mu bapfuye, ko ari ho hatumye uyu muntu ahagarara imbere yanyu, akomeye. Uwo niwe buye mwebwe abubatsi mwatituye, kandi ryahindutse irigumya imfuruka. Kandi nta wundi agakiza kabonerwamwo, kuko ata rindi zina musi y'ijuru ryahawe abantu dukwiye gukirrizwamwo.» Uku kwiregura ashize amanga gutangaza abarongozi b'Abayuda. Bari bibwiye ko abigishwa bazogira ubwoba kandi bakazazanirwa bashitse imbere y'urwego rukuru rw'ubucamanza. Ariko bavuga nk'uko Kristo yavuga, bavugana ubushobozi bwatumye ababarwanya babura ico basubiza. Nta n'ikanda ry'ubwoba mw'ijwi rya Petero igihe yemangira Kristo ati, «Uwo niwe' buye mwebwe abubatsi mwatituye, kandi ryahindutse irigumya imfuruka.»

Petero yakoresheje hano imvugo ngereranyo abaherezi bamenyereye. Abavugishwa n'Imana bari baravuze ivy'ibuye ryatituwe; kandi Kristo ubwiwe, rimwe na rimwe yarigeze kubwira abaherezi n'abakurambere ati : «Ntaho murasoma mu Vyanditswe ngo ibuye abubatsi bagaye niryo ryahindutse irigumya imfuruka: Ivyo vyavuye k'Uhoraho, kandi n'igitangaza mu maso yacu ? Nico gitumye ndababwira ko ubwami bw'Imana muzobwakwa, bugahabwa ihanga ryama imbuto zabwo. Ariko uwuzogwa kuri iryo buye azovunagurika; ariko uwo rizogwako rizomuvungura.» Matayo 21 :42-44. Abaherezi babonye ugushira amanga kw'intumwa «bamenya ko babana na Yesu.» Ku vyerekeye abigishwa, Kristo amaze guhinduka ukundi, handitswe ko inyuma y'ico gitangaza «ntibagira uwundi babona, atari Yesu wenyene.» Matayo 17:8. «Yesu wenyene.» Muri aya majambo harimwo ibanga ry'ubuzima n'ubushobozi vyaranze ishengero rya mbere. Ubwa mbere abigishwa bumvise amajambo ya Kristo, baciye bumva ko bamukeneye. Baramurondeye, bara-

muronse, baramukurikira. Bari kumwe nawe mu rusengero, ku meza, ku nkengera y'umusozi, mu murima. Bari nk'abigishwa bari kumwe n'umwigisha, buri musi bamuronkako inyigisho z'ubugingo budashira.

Umukiza amaze kuduga mw'ijuru, bakomeje kwiyumvamwo ko Imana iri kumwe nabo, buzuye urukundo n'umuco. Vyasa nk'uko Yesu wenyene ari kumwe nabo amaso mu yandi. Yesu, Umukiza yari yagendanye nabo, akavugana nabo, agasengana nabo, yari yababwiye amajambo y'ivyizigiro kandi ahumuriza imitima, yari yabakuwemwo ajanwa mw'ijuru, ubwo butumwa bw'amahoro bukiri mu kanwa kiwe. Ubwo umukogote w'abamarayika wamwakira, bumvise amajambo yiwe,» Ehe ndi kumwe namwe imisi yose, gushika ku muhero w'isi.» Matayo 18 [34]
:2o. Yaduze mw'ijuru mw'ishusho y'umuntu. Batahuye ko ari imbere y'intebe y'ubwami bw'Imana, agakomeza kuba Umugenzi n'Umukiza; batahuye ko impuhwe ziwe zitahindutse; ko ibihe vyose azokwifatanya n'abantu bari mu mibabaro. Baratahuye ko ariko arashikiriza imbere y'intebe y'Imana igikorwa c'amaraso yiwe, yerekana inkovu z'ibiganza n'ibirenge vyiwe. Nk'icibutso c'ikiguzi yatanze ku bwo abacunguwe; kandi ico cibutso carabakomeje ngo bihanganire guhamwa ku bwiwe. Ubumwe bwabo bwari bukomeye kuruta igihe yari kumwe nabo mu mubiri. Umuco n'urukundo n'ubushobozi vya Kristo muri bo vyarabakayanganako, ku buryo abantu babibona, batangara.

Kristo yashize ikidodo ku majambo Petero yavuze yiregura. I ruhande y'uwo mwigishwa, wa mugabo yari yakize mu buryo bw'igitangaza, yari ahagaze nk'icabona ntahinyuzwa. Kuboneka kw'uyu mugabo, mu masaha aheze yari ikimuga cihebuye ubu akaba yakize, kwongereje uburemere bw'igishingantahe c'amajambo ya Petero. Abaherezi n'abarongozi ubwanwa bwarafutse umunwa. Ntibashoboye kuvuguruza amajambo ya Petero, ariko naho vyabaye uko, bahisemwo kwihanikiriza inyigisho z'intumwa. Igitangaza rurangiranwa-izuka rya Lazaro-catumye abaherezi bafata ingingo yo kuzimanganya Yesu n'ibikorwa vyiwe bitangaje, vyariko biratuma ububasha bafise ku bantu bugera ahanyerera. Bari bamubamvye; ariko noneho habonetse icemezo ntahinyuzwa cerekana ko batari bahagaritse ibitangaza vyakorwa mw'izina ryiwe, canke ngo babuze

kwamamara kw'ukuri yigishije. Gukira kw'ikimuga, n'inyigisho z'intumwa, vyari vyatumye Yerusalemu igwa mu gahundwe.

Kugira ngo bahishe ibimaramare vyabo, abaherezi n'abaganza bategetse ko intumwa zibataramukira, ngo babone ingene boja inama. Bose bumvikana ko guhakana ko uwo muntu yakize ataho vyobashikana. Biyumviye gufukafukisha ikinyoma ico gitangaza, ariko ntivyari gushoboka, kuko cari cakozwe izuba ryaka, imbere y'isinzi ry'abantu, kandi ibihumbi n'ibihumbi bari bamaze kubimenya. Biyumviriye bati igikorwa c'abigishwa gitegerezwa guhagarikwa, naho bitabaye bityo Yesu agiye kwirundanirizako abantu. Akabo kazoba gashitse, kuko bazokwagirwa n'uko bishe Umwana w'Imana. Ariko naho nyene abaherezi bifuje kurandura abo bigishwa, ntibubahutse kugira ico bakora, kiretse kubakangisha igihano ruhasha ni bakomeza kuvuga canke gukora mw'izina rya Yesu. Bongeye kubahamagara imbere y'Ubucamanza bukuru, bababuza kwongera kuvuga canke kwigisha mw'izina rya Yesu, ariko Petero na Yohana bishuye: «Namba ari vyiza mu maso y'Imana kubumvira kubarutisha Imana, ni mubitandukanye. Kuko tweho tudashobora kureka kuvuga ivyo twabonye n'ivyo twumvise.»

[35] Vyari gushimisha abo baherezi guhana abo bagabo kuko batayegayega ku muhamagaro wabo wera, ariko batiaya abanyagihugu; «Kuko abantu bose bashima Imana ku vyo yakoze.» Baherako bahamagara intumwa, barazitonagura barazihanikiriza ngo ntibaze bigishe mw/izina rya Yesu, maze barazirekum Igibe Petero na Yohana bari mw'ibohero, abandi bigishwa, kuko bari bazi ububisha bw' Abayuda, basenga urudaca ku bwa bagenzi babo, batinya ko ubunyamaswa beretse Yesu busubira. Bimo nyene zivuye mw'ibohero, intunrwa zarondeye abandi bigishwa ngo bababarire ingene vyagenze. Abizera baranezerewe cane, «bavuga n'ijwi rirenga babwira Imana n'umutima uhuye, bati Databuja, ni wewe waremye ijuru n'isi, ikiyaga, n'ibirimwo vyose, kandi wavugiye mu kanwa ka sogokuruza Dawidi, umusavyi wawe, abivugisha Mpwemu Yera, uti abanyamahanga ni iki kibateye umuvurungano, n'amoko yagiriye ingingo iki ivy'ubusa? Abami bo mw'isi batonze urugamba, n'abakuru bakoraniye hamwe, kurwanya Uhoraho n'Uwo yarobanuje amavuta. Kandi vy'ukuri muri iki gisagara, Herode, bo na Pontiyo Pilato hamwe n'abanyamahanga n'imiryango ya Isirayeli, bakoranye kurwanya Umushumba wawe

Yera Yesu, uwo warobanuje amavuta, ngo bashitse ivyo ukuboko kwawe n'inama yawe vyari vyaragabiye vyose ko bizoza. Kandi noneho, Mwami, raba agahahirizo kabo, uhe abasavyi bawe kuvuga ijambo ryawe bashize amanga rwose: ukiramvuye ukuboko kwawe gukiza indwara, ibimenyetso n'ibitangaza bikorwe mw'izina ry'Umwana wawe Yera Yesu.» Ivyakozwe n'Intumwa 4 :24-30. Abigishwa barasenze ngo bahabwe inkomezi zihambaye cane ku bw'igikorwa cabo; kuko babonye ko bazohura n'inzitizi nk'izo Kristo yahuye nazo igihe yari kw' isi. Igihe, amasengesho yabo yaduga mw'ijuru yuzuye ukwizera, bararonse inyishu. Aho bari bakoraniye hahinze umushitsi, bongera kuronswa Mpwemu Yera. Imitima yabo yuzuye ubushizi bw'amanga, bongera bagenda kwamamaza Ijambo ry'Imana i Yerusalemu. «Intumwa zishingira intahe izuka ry'Umwami Yesu bafise ubushobozi bwinshi,» maze Imana ihezagira utwigoro twabo mu buryo butangaje.

Ico abigishwa bahagazeko badatinya, igihe bababarira ngo ntibongere kuvuga mw'izina rya Yesu, «Namba ari vyiza mu maso y'Imana kubumvira kubarutisha Imana, ni mubitandukanye,» nico abahizi b'ubutumwa bwiza banse gutirimukako mu bihe yy'Ubugorozi. Igihe muri 1529 abatware b'Ubudagi bakoranira imbere y'Inama Nshingamateka y'i Sipiresi, umwami w'abami yashinze itegeko ribangamira umwidegemvyo w'idini, kandi ribuza kwongera gukwiragiza inyigisho z'ubugorozi. Mbega abo batware bari kugamburukira iryo tegeko ? Mbega umuco w'ubutumwa bwiza wari kubuzwa gushikira amasinzi y'abantu bakiri mu muzimagiza ? Ibibazo bihambaye biraba isi vyari imbere yabo. Abari baremeye [36]
ukwizera kw'Abagorozi, barakoranye, kandi ingingo ya bose yabaye : «Reka twiyamirize iri tegeko. Mu biraba umutimanama, igitigiri nyamwinshi ntigifise ubushobozi.» Merle d'Aubigne, History of the Reformation, book. 13, chap.5.

Iyi ngingo niyo dutegerezwa guhagararako mu gihe cacu. Ibendera y'ukuri n'umwidegemvyo w'idini ryadugijwe n'abashinze umushinge w'ubutumwa bwiza n'ivyabona vy'Imana mu binjana vyahise, muri iyi ntambara iheruka, yashizwe mu maboko yacu. Kuzigama iyi ngabire ikomeye biri ku gatwe k'abo Imana yahezagije ubumenyi bw'Ijambo ryayo. Dusabwa kwakira iri jambo nk'ububasha burengeye vyose. Dutegerezwa gufata ubutegetsi bw'abantu nk'ubwashizweho n'Imana, kandi tukigisha kubugambu-

rukira nk'igikorwa cera, tutarenze imbibe. Ariko, iyo ivyo busaba birwana n'ivyo Imana isaba, dutegerezwa kwubaha Imana kuyirutisha abantu. Ijambo ry'Imana ritegerezwa kumenyekana nk'iriri hejuru y'amategeko yose y'abantu. Ya majambo «Uku ni ko Uhoraho avuze», ntashobora gusubirizwa na «Uku niko Ishengero rivuze,» canke «Uku niko Leta ivuze.» Urugori rwa Kristo rutegerezwa gushirwa hejuru y'ingori z'abategetsi b'isi.

Nti dusabwe kugambararira abategetsi. Amajambo yacu, yaba ayavugwa canke ayandikwa, ategerezwa kwitonderwa cane, bitabaye bityo, tuzoshirwa ku rutonde rw'abarwanya amategeko, n'abahungabanya umutekano. Nti dushobora kuvuga canke gukora ikintu ico arico cose cotwugarira inzira bidakenewe. Dutegerezwa kuja imbere mw'izina rya Kristo, turwanira ukuri twashinzwe. Bishitse abantu bakatubuza gukora iki gikorwa, aho niho tuzovuga nk'intumwa, tuti «Namba ari vyiza mu maso y'Imana kubumvira kubarutisha Imana, ni mubitandukanye. Kuko tweho tudashobora kureka kuvuga ivyo twabonye n'ivyo twumva.

## Ikigabane ca 7: Kugabisha Indyadya

*Iki kigabane gishimikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 4:32gtishika 5:11.*

Ubwo abigishwa bamamaza ukuri muri Yersalemu, Imana yashingiye intahe ijambo ryabo, maze abantu isinzi barizera. Benshi muri abo bizera bambere baciye bacibwa bomorwa mu miryango no mu bagenzi, ku bw'Abayuda b'intagondwa, hanyuma biba ngombwa ko baronswa ico barya n'aho bakika umusaya. Ivyanditwe bivuga ngo «Nta mukene yari muri bo.» Birongera bikavuga n'ingene bamaze ubwo bukene. Abo mu bizera bari bafise amahera n'amatungo babitanga n'umutima ubikunze, ngo bakize ingorane zihutirwa. Baragurisha amazu n'amatongo yabo, bakazana ikiguzi imbere y'ibirenge vy'intumwa, «hanyuma bakabigabanganya abantu, umuntu wese uko akenye.» Uyu mutima wo gutanga w'abizera, [37] yari ingaruka yo gusukwa kwa Mpwemu Yera. Abahindukiriye ubutumwa bwiza «bari bahuje umutima n'inama.» Intumbero imwe gusa niyo yabategeka-kuroranirwa kw'igikorwa bashinzwe; kandi nta kwifuza kwarangwa mu buzima bwabo. Ibikorwa vyabo vyagaragaza ko imitima y'abantu bayiha agaciro kuruta ubutunzi bw'isi. Uko niko bizomera, igihe Mpwemu w'Imana azokwizizira ubuzima. Aho imitima yujujwe n'urukundo rwa Kristo, bazokurikira akarorero kiwe, We yigize umworo ku bwacu, ngo mu bworo bwiwe tube abatunzi. Amahera, umwanya, ijunja,-ingabire zose bahawe n'Imana, bazoziharura nk'uburyo bwo guteza imbere igikorwa c'ubutumwa bwiza. Uku niko vyari bimeze mw'ishengero rya mbere; kandi iyo bibonetse mw'ishengero rya none ko mu bushobozi bwa Mpwemu abizera bakuye ivyifuzo vyabo ku bintu vy'iyi si, kandi bakemera kwitanga ngo bagenzi babo bumve ubutumwa bwiza, ukuri kuvugwa kuzogira inkomezi zikwegakwega abakwumviriza.

Akarorero abizera berekanye mu gutanga, gatandukanye cane n'inyifato ya Aniya na Safira, abo Ivyanditswe Vyera bivuga, basize umugani mubi kuri kahise k'ishengero rya mbere. Hamwe

n'abandi, abo bantu bivuga ko ari abigishwa, bari basangiye n'abandi amahirwe yo kwumva ubutumwa bwiza bwigishijwe n'intumwa. Bari hamwe n'abandi bizera igihe, intumwa zimaze gusenga, «Aho bakoraniye hatigita, bose buzuzwa Mpwemu Yera.» Ivyakozwe n'Intumwa 4:31. Abantu bose bari aho bari banyuzwe, kandi ku bw'igikorwa ca Mpwemu w'Imana, Ananiya na Safira bari biyemeje gushikanira Umwami ikiguzi c'itongo runaka. Inyuma y'aho, Ananiya na Safira barababaje Mpwemu Yera mu kwemera kuganzwa n'ukwifuza. Batangura kwicuza isezerano ryabo, kandi bidatevyye batakaza umunezero w'umuhezagiro wari wujuje imitima yabo icifuzo co gukora ibihambaye ku bw'igikorwa ca Kristo. Biyumviriye ko bari bafashe ingingo ihutihuti, ko vyari ngombwa ngo bongere kwihweza ingingo yabo. Barabiganira, hanyuma bahitamwo kudashitsa isezerano ryabo. Ariko kandi, babonye ko abatanze ivyabo ngo bagoboke abavandimwe b'abakene, bahabwa icubahiro kinini mu bizera; kandi kubera batinya ko bomaramara bagenzi babo bamenye ko imitima yabo yo kwikunda yicujije gutanga ico bari basezeraniye Imana ku mugaragaro, bahitamwo kugurisha itongo ryabo, n'ukubesha ngo ikiguzi cose cashizwe mu bubiko rusangi, ariko bigumirije uruhara runini. Gutyo rero bakagumya igice kimwe kizokomeza kubatunga, bakagumana n'icubahiro hagati y'abandi bizera.

Ariko Imana iranka uburyarya n'ububeshi. Ananiya na Safira bakoresheje ubugunge mu vy'Imana; bahenze Mpwemu Yera, kandi icaha cabo cahanywe vy'akarorero. Ananiya azanye ishikanwa ryiwe, Petero yavuze ati: «Ananiya, ni iki gitumye Satani yuzuza
[38] umutima wawe guhenda Mpwemu Yera, ukisigariza ku biguzi vy'itongo? Ukirifise ntiryari iryawe ? Kandi umaze kurigurisha, ibiguzi vyaryo nt'uba warabikoze uko ugomba ? Ni iki catumye wigira ingingo mu mutima wawe gukora utyo ? Si abantu uhenze, Imana ni yo uhenze.» «Ananiya yumvise ayo majambo agwa bukumbi: abavyumvise bose baterwa n'ubwoba bwinshi.»

Petero yabajije ati «ukirifise ntiryari iryawe?» Nta kintu na kimwe cari cahatiye Ananiya gutanga ivyiwe ku bw'ineza ya bose. Yari yabihisemwo ata gahato; ariko mu kugerageza guhenda abigishwa, yari yahenze Inshoboravyose. «Haheze nk'isaha zitatu, umugore wiwe arinjira, atazi ivyabaye; Petero aramubaza ati Mbarira: mbega itongo

mwariguriishije ayo yonyene? Aramwishura, ati Egome, ni ayo. Petero aramubaza, ati ni iki gitumye muhuza inama kugerageza Mpwemu w'Umwami Imana? Ehe ibirenge vy'abahejeje guhamba umugabo wawe biri ku rugi, nawe birakujana. Uwo mwanya agwa imbere y'ibirenge vyiwe bukumbi. Ya misore yinjiye isanga amaze guhwera, iramujana, imuhamba i ruhande y'umugabo wiwe. Ishengero ryose n'abavyumvise bose baterwa n'ubwoba bwinshi.»

Ubwenge Buhebuje bwabonye ko iki kimenyetso c'uburake bw'Imana cari gikenewe kugira ngo iryo shengero ry'umuyabaga rikingirwe gucika intege. Igitigiri cabo ciyongera vuba vuba. Ishengero ryari kuja mu kaga, iyo abizera biyongera vuba vuba, ryiyongerako abagabo n'abagore, bavuga ko bakorera Imana, kandi bariko barasenga mamoni. Uru rubanza rwagaragaje ko ata muntu ashobora guhenda Imana, ko ivumbura icaha gihishijwe mu mutima, kandi ko itazocokorwa. Ivyo vyabaye nko kugabisha ishengero, ngo birinde kwiyoberanya n'uburyarya, no kwirinda kugunga Imana.

Si kw'ishengero rya mbere gusa, ahubwo no ku mashengero yo mu ruvyaro rwose ruzoza, aka ni akarorero kererekana ko Imana yanka ukwifuza, ubugunge, n'ubudyadya, katanzwe nk'ikimenyetso c'irinde ry'urupfu. Ukwifuza ni ko Ananiya na Safira bakuyakuye. Icifuzo co kugumya umugabane ku vyo basezeraniye Umwami, cabasutse mu bugunge n'uburyarya. Imana yageze ko ubutumwa bwiza buzotungwa n'ibikorwa hamwe n'amashikanwa y'abantu bayo. Amashikanwa n'ibigiracumi bitanzwe bivuye ku mutima ubikunze, ni vyo bigize umutahe w'igikorwa c'Umwami. Ku buryo umuntu yahawe, Imana isabako uruhara runaka-ikigiracumi. Imana irekera abantu bose uburengazira bwo guhitamwo gutanga ibirenze ivyo. Ariko iyo umutima ukozweko na Mpwemu Yera, umuntu agasezerana gutanga ikintu runaka, uwo yatanze isezerano ntaba agifise uburenganzira bwo gukora kuri ico kintu yasezeraniye Imana. Iyo ayo masezerano agirirwa abantu yobaye ntabanduka; mbega ayagiriwe Imana Amasezerano agiriwe muri sentare y'umutimanama, [39] yoba arutwa n'amasezerano yanditswe abantu bumvikanyeko?

Iyo umuco w'Imana ukayanganiye mu mutima, ukagaragara mu buryo budasanzwe n'ubushobozi, ukwikunda kwari kuhasanzwe kurahunga, umuntu akemera gutanga ku bw'igikorwa c'Imana. Ariko ntihagire umuntu azokwiyumvira ko azokwemererwa gushitsa amasezerano yagize, Satani atabanje kumurwanya. Ntanezerwa no

kubona ubwami bw'Umucunguzi kw'isi buroranirwa. Arahenda-henda abantu ngo basezeranye vyinshi cane, ngo bizotuma bagira ingorane mu twigoro twabo two kuronka ubutunzi, canke mu kumara ubukene imiryango yabo. Imana ni yo ihezagira abantu mu kubaha ubutunzi, kandi ibikora ngo ibabashishe guteza imbere igikorwa cayo. Irungika izuba n'imvura. Ituma imirima itotahara. Itanga amagara meza, ikabashoboza kuronka uburyo. Imihezagiro yose iva mu kiganza cayo gitanga kititangiriye itama. Hanyuma rero, nayo igasaba ko abagabo n'abagore berekana ugushima kwabo mu kuyi-garurira ibigiracumi n'amashikanwa-mu buryo bw'amashikanwa yo gushima, amashikanwa y'ubushake, amashikanwa y'ivyaha. Iyo aba amashikanwa yisuka mu kigega muri ubu buryo Imana yabitegetse,-ikigiracumi c'inyungu zose, n'amashikanwa atubutse,-hobaye umurengera woteza imbere igikorwa c'Umwami.

Ariko imitima y'abantu ikomantazwa n'ukwikunda, kandi, nk'uko vyabaye kuri Ananiya na Safira, bageramirwa no kugumya umugabane w'ikiguzi, kandi bakomeza kwihenda ngo bariko barashitsa ivyo Imana ibasaba. Benshi bakoresha amahera mu buryo bwo kwinezereza. Abagabo n'abagore barondera kwiry-ohererwa, bagashikanira Imana inticantikize bijiriwe. Biba-gira ko umusi uri izina Imana Izobasaba kusigura ingene bako-resheje ubutunzi yabahaye, kandi ko Itazongera kwakira ubusa bazana mu bubiko bwayo, nk'uko Itakiriye ishikanwa rya Ananiya na Safira. Kuri iki gihano ruhasha cahawe abantu barahira iz'ibinyoma, Imana yashaka ko dutahura ingene yanka urunuka uburyarya n'ububeshi bwose. Mu kwiyorobeka ngo batanze vyose, Ananiya na Safira bahenze Mpwemu Yera, kandi inkurik-izi yavyo, batakaje ubu bugingo, n'ubugingo buzoza. Iyo Mana yabahanye, n'uyu musi icira urubanza ububeshi bwose. Iminwa ibesha ni igisesema kuri Yo. Ivuga yemanga ko mu Gisagara Cera«hatazogera...gihumanya, cank'uwukora ibizira akabesha.» Ivyahishuriwe Yohana 21:27. Ni mureke ukuri gushirwe imbere. Ni mureke kube kimwe mu bigize ubuzima. Kugira ububeshi igikinisho, ugahisha imigambi y'ukwikunda ushaka gushikako, ibi bisa no guta ukwizera. «Nuko rero mushikame, mukenyeje ukuri, mwambaye ukugororoka nk'icuma gikingira igikiriza.» Abanyefeso 6:14. Uwu-vuga ibinyoma agurisha umutima wiwe ku ntica ntikize. Ikinyoma ciwe gishobora gusa n'ikimugobotse mu gihe c'akaga; ashobora

gusa n'uwushitse ku nyungu atari gushikako igihe yari kuvuga ukuri; [40] ariko amaherezo azoshika ku rwego aho adashobora kwizera umuntu n'umwe. Kuko we ubwiwe ari umubeshi, ntiyizera abandi.

Kuri Ananiya na Safira, icaha co kugunga Imana cahanywe buno nyene. Ico caha congeye gukorwa no mu misi yakurikiye muri kahise k'ishengero, kandi gikorwa n'abantu beshi mu gihe cacu. Ariko n'aho umujinya w'Imana utoca wigaragaza muri ako kanya nyene, ntabwo mu maso yayo kibura kuba kibi nk'uko cari mu gihe c'intumwa. Twaragabishijwe; Imana yarerekanye ko izinukwa iki caha ; kandi abantu bose bihebeye uburyarya n'ukwifuza, ni bamenye ko bariko bararimbura imitima yabo.

## Ikigabane ca 8: Imbere Ya Sentare Nkuru Y’abayuda

*Iki kigabane gishimikiye ku Vyakozwe n ‘lnlumwa 5:12-42*

Ni umusaraba, iki gikoresho c’isoni n’ihohotera, wazanye ivyizigiro n’agakiza mw’isi. Abigishwa bari abantu biyoroheje, batagira ubutunzi, batagira ikirwanisho kiretse ijambo ry’Imana ; ariko mu nkomezi za Kristo bagiye kuvuga inkuru itangaje y’ubwato bw’inka n’umusaraba, batsinda ababarwanya bose. Naho batari bafise icubahiro c’isi canke ngo bemerwe, bari abahizi b’ukwizera. Mu kanwa kabo havuye amajambo atangaje y’Imana yahindishije isi agashitsi. Muri Yerusalemu, ahari intagondwa kuruta ahandi, aho kandi ivyiyumviro bigoramye ku vyerekeye Kristo yabambwe nk’umunyakibi vyari vyaratse indaro, abigishwa bakomeje kuvuga bashize amanga amajambo y’ubuzima, bereka Abayuda igikorwa n’ibango rya Kristo, ukubambwa kwiwe, izuka ryiwe n’iduga ryiwe mw’ijuru. Abaherezi b’abategetsi baratangaye bumvise intumwa zishinga intahe n’ubushizi bw’amanga, ubushobozi bw’Umukiza yazutse bwari bwamanutse ku bigishwa koko; kandi igikorwa cabo caherekezwa n’ibimenyetso n’ ibitangaza vyongereza buri igitigiri c’ abizera. Mu mayira aho intumwa zategerezwa guca, abantu bazana abarwayi babo «mu nderuzo no ku birago, kugira ngo Petero ni yahaca, naho hoba igitutu ciwe gishike kuri bamwe.» Barahazana n’abasinzikajwe n’impwemu zihumanye. Abantu isinzi barabahundara ko, maze abakize indwara zabo bagashira amajwi hejuru bashima Imana kandi baninahaza izina ry’Umucunguzi.

Abaherezi n’abategetsi babona ko Yesu ahawe icubahiro kiruta icabo. Abasadukayo, abatemera izuka, bumvise ko Petero avuze ko Kristo yazutse, ishavu rirazirirringa, babonye ko ni bareka intumwa kwigisha Umukiza yazutse, n’ugukora ibitangaza mw’izina
[41] ryiwe, inyigisho ivuga ko ata zuka rizobaho yoca yiyamirizwa na bose, kandi ko n’idini ry’Absadukayo ryoca rizimangana. Abafarisayo bashavujwe n’ukubona ko inyigisho z’intumwa zigender-

eye gutitura imihango y'idini ry'Abayuda, n'ugukuraho ibimazi vy'impongano. Gushika ubu utwigoro twose bakoze ngo batuze izo nyigisho nsha twari twabaye impfagusa; ariko noneho Abasadukayo n'Abayuda bafata ingingo ko igikorwa c'abigishwa gitegerezwa guhagarara, kuko cabagiriza urupfu rwa Yesu. Abaherezi buzura ishari, bashorera amaboko ku ntumwa, bazishira mu nzu y'ibohero rya bose.

Abategetsi b'Abayuda bari barananiwe gushira mu ngiro umugambi Imana yari yarabatoreye nk'ihanga yitoranirije. Abo Uhoraho yari yabikije ukuri berekanye ko batabaye abizigirwa, maze Imana itora abandi ngo bakore igikorwa ciwe. Mu buhumyi bwabo, abo barongozi noneho basutse ico bobo bita ishavu ryera, kuri abo bantu bariko bariyamiriza inyigisho zabo barutisha vyose. Nti bashobora n'ukwemera ko batatahura neza iryo jambo, canke ko basobanuye nabi bongera bakoresha nabi Ivyanditswe. Bifashe nk'abantu bataye umutwe. Bavuga bati, aba bigisha ni ubuhe burenganzira bafise, bamwe muri bo bari abarovyi, bwo guserura inyigisho zitandukanye n'izo bigishije abanyagihugu? Bigira inama yo kurandura ivyo vyiyumviro, mu gufunga abo bariko baravyigisha. Abigishwa nti batewe ubwoba canke ngo bacike intege ku bw'ako gahahazo. Mpwemu Yera yabibukije amajambo Kristo yavuze: Umushumba ntaruta shebuja; namba barampamye, namwe bazobahama ; namba baritondeye ijambo ryanje, n'iryanyu bazoryitondera. Ariko ivyo vyose bazobibagirira babahora izina ryanje, kuko batazi Uwantumye.» «Bazobaca mu masinagogi: kandi igihe kigiye kuza;' uwuzobica azogira ngo agiriye Imana ikimazi.» «Ivyo ndabibabariye kugira ngo igihe ni cashika, muze muvyibuke ko nanje nabibabwiye.» Yohana 15:20,21; 16:2,4.

Imana yo mw'ijuru, Nyene inkomezi Segaba w'amahanga, ico kibazo c'ifungwa ry'abigishwa igifata mu minwe, kuko abantu bariko barwanya igikorwa cayo. Maze umumarayika w'Umwami Imana ahengera mw'ijoro yugurura inzugi z'ibohero, abakurayo, abwira abigishwa ati: «Ni mugende, muhagarare mu rusengero, mubarire abantu amajambo yose ya bwa bugingo.» Iri tegeko ryari riteye kubiri n'iryo bari bahawe n'iry'abategetsi b' Abayuda; ariko intumwa zivuga ziti Ntidushobora kubikora tutarabaza abacamanza ngo baduhe uburenganzira. Imana ibabwira iti Oya, «Ni mugende,» baherako baragftmburuka. «Binjira mu rusengero nko mu mutwenzi,

barigisha.» Petero na Yohana bashitse mu bizera bakababwira ingene umumarayika yabacishije hagati y'abasirikare barinda ibohero, abasaba kubandanya igikorwa bari bahagaritse, baratangaye buzura
[42] akanyamuneza. Ico gihe umuherezi n'abari kumwe nawe, bobo bari «bahamagaje inama, n'abakuru b'Abisirayeli bose.» Abaherezi n'abategetsi bari bigiriye inama yo kurega abigishwa ngo bagumuye abanyagihugu, no kubagiriza ko bishe Ananiya na Safira, kandi ko biyunze ngo barwanye ububasha bwabo. Bibwira ko abanyagihugu baca bavyemera, bagahohotera abigishwa nk'uko bari bakoreye Yesu. Bari bazi ko benshi mu batakiriye inyigisho za Kristo bari bababajwe n'intwaro y'agahotoro y'Abayuda, kandi barindirana igishika ihinduka. Abaherezi batinya ko abo bantu batanezerewe, ni bemera ukuri intumwa zigisha, bakemera Yesu nka Mesiya, abantu bose bazoca bashavurira abarongozi b'idini, bagaca babagiriza urupfu rwa Kristo. Bafata ingingo zikomeye zo kubuza ko ivyo bintu bishika.

Igihe batumako za mbohe ngo zirenguke imbere yabo, barumiwe kwumva ko inzugi basanze zugaye neza, abarinzi bahagaze imbere yazo, ariko imbohe ata na hamwe zibarizwa. Bidatevye haza inkuru itangaje ngo: «Erega ba bagabo mwashira mw'ibohero bari mu rusengero bahagaze bigisha abantu. Maz'umukuru w'abarinzi b'urusengero ajana n'abagendanyi, babazana ku neza, kuko batinya abantu ngo ntibabatere amabuye.» Naho intumwa zari zabohowe mu buryo bw'igitangaza, ntibari bakingiwe intahe n'igihano. Kristo yari yarababariye akiri kumwe nabo, «Ariko mwiyubare: kuko bazobashengerana mu manza,

muzoshishagurirwa mu masinagogi, kandi muzohagarara imbere y'abaganza n'abami babampora.» Mariko 13:9. Mu kurvmgika umumarayika ngo ababohore, Imana yari yabahaye ikimenyetso c'urukundo rwayo, n'ikimenyamenya ko iri kumwe nabo. Hari hageze aho nabo bababazwa ku bw'Uwo bariko barigisha ubutumwa bwiza.

Muri kahise k'abavugishwa n'Imana n'intumwa, hari uturorero twiza tw'abantu babereye Imana abizigirwa. Ivyabona vya Kristo vyarihanganiye umunyororo, agatotezo, mbere n'urupfu, aho guhonyanga ivyagezwe vy'Imana. Ibivugwa kuri Petero na Yohana, biranga ubutwari mu bindi vyose vyanditswe mu nkuru nziza. Ubwo bongera guhagarara imbere y'abo bagabo bari biteguye kubarandura,

nta bwoba canke gukekeranya vyababonetseko haba mu majambo canke mu nyifato. Kandi igihe umuherezi mukuru yavuga, «Mbega ntitwabihanije cane kutigisha muri rya zina? None raba mwujuje Yerusalemu inyigisho zanyu; ico murondera n'ukudushirako amaraso ya wa muntu,» Petero yishuye, «Igikwiriye n' ukwumvira Imana kuyirutisha abantu.» Umumarayika avuye mw'ijuru niwe yababohoye kandi abategeka kwigisha mu rusengero. Kwuvira amategeko yiwe, kwari kwumvira itegeko ry'Imana, kandi bategerezwa kubibandanya vyanka bikunda. Maze Mpwemu Ahumekera aza ku bigishwa; abaregwa noneho bahinduka abarega, bagiriza urupfu rwa Kristo abagize sentare. Petero avuga ati, «Imana ya ba sogokuruza yazuye Yesu, «Uwo mwebwe mwishe mumumanitse ku giti. Uyo [43]
Imana yaramushize hejuru n'ukuboko kwayo kw'i buryo, ngo abe Umukuru n'Umukiza, ngo ahe Abisirayeli kwihana no guharirwa ivyaha. Natwe turi ivyabona vyo kubashingira intahe ivyo, na Mpwemu Yera na we n'uko, uwo Imana yahaye abayumvira.»

Abayuda bavyumvise riraniga, bafata ingingo yo kubiheraheza batarinze no guca urubanza, canke batabajije ubutegetsi bw'Abarongozi b'Abaroma, kwica izo mbohe. Bamaze kwagirwa n'amaraso ya Kristo, ubu naho bagira banduze intoke zabo n'amaraso y'abigishwa biwe. Maze hahaguruka umwe muri sentare, yatahuye ijwi ry'Imana mu majambo yavuzwe n'abigishwa. Uyu yari Gamaliyeli, Umufarisayo w'intungane, umwigisha w'ivyagezwe yubahwa n'abantu bose. Ubwenge bwiwe bubona kure bwabonye ko intambwe y'agahotoro abaherezi biteguye gushikako yari kuzana ingaruka ziteye ubwoba. Imbere yo kuvugana n'abari aho, asaba ko izo mbohe zitaramuka. Yari azi neza ko bitoroshe; yari azi ko abo bantu bishe Kristo ata nakimwe cobabuza gushika ku mugambi wabo. Maze abwira ikoraniro ryose, yitonze, ati: Yemwe bagabo b'Abisirayeli, ni mwirinde mumenye uko mugirira aba bantu: Kuko mu misi ishize, Teyuda yadutse yiyita agakomeye, igitigiri c'abantu gishika nk'amajana ane gikondorera inyuma yiwe: maze aricwa, abamwumvira bose barasabagira, bacika ubusa. Hanyuma yiwe haduka Yuda Umugalilaya, mu misi yo kwandikwa, yikwegera abantu inyuma; nawe apfa rubi, n'abamwumvira bose uko bangana barasabagira. Kandi none ndababwire, ni muzibukire aba bantu, mubarekure: kuko iyi nama n'ibi

bikorwa ni vyaba biturutse ku Mana, ntimuzoshobora kubatsinda, mwoye kuzosanga murwanya Imana.»

Abaherezi babona ko ibi vyiyumviro bitomoye, bumva ko ata kundi bobigira, bemeranya na Gamaliyeli. Ariko ubugome bwabo n'urwanko rwabo ntivyabemereye kwihangana. Bapfa kuvyihoza, maze bamaze gutonagura intumwa no kuzihanikiriza ngo ntizize zigishe mw'izina rya Yesu, barazirekura. «Nuko bava imbere ya sentare, banezerejwe n'uko bemerewe gutetererezwa iryo zina. Kandi imisi yose mu rusengero no mu mihana ntibahorereza kwigisha no kuvuga ubutumwa bwiza bwa Yesu, Ko ari we Kristo.»

Imbere gato yo kubambwa kwiwe, Kristo yasigiye abigishwa biwe iragi ry'amahoro. Avuga ati,«Amahoro ndayabasigaranye, amahoro yanje ndayabagabiye: Jeho sindabagabira nk'uko ab'isi bayagaba. Imitima yanyu ntihagarare, kandi ntitinye.» Yohana 14:27. Aya mahoro si amahoro atangwa n'ukwishushanya n'isi. Kristo ntiyigeze aronderera amahoro mu kwifatanya n'ikibi. Amahoro Kristo yasigiye abigishwa ni ayo mu mutima, si ayo hanze, kandi yategerezwa kubana nabo mu kaga no mu ntambara.

Kristo yavuze yishirako ati, «Mwoye kwiyumvira ko naje gutera amahoro mw'isi: sinaje gutera amahoro, atari inkota.»
[44] Matayo 10:34. Naho yari Umwami w'Amahoro, yatumye abantu basubiranamwo. Uwari yazanywe n'ugutangaza inkuru nziza, n'ukuzana ivyizigiro n'umunezero mu mitima y'abana b'abantu, yuguruye inzira y'urugamba rushushe cane n'imitima y'intagondwa. Niko kugabisha abigishwa biwe, ati «Mw'isi muri n'amarushwa.» «Bazobashorerako amaboko, babahame, babashengerane mu masinagogi, babashirishe mu mabohero, babashengeze ku bami no ku baganza, babahora izina ryanje.» Muzoshengezwa n'abavyeyi banyu na bo, na bene nyoko n'incuti n'abakunzi, bamwe muri mwebwe bazobica.» Yohana 16:33; Luka 21:12, 16.

Iyi mburi yashitse neza cane. Igikorwa cose c'agatituro, c'agashinyaguro, n'ubunyamaswa Satani yashoboye kuryosharyosha ngo imitima y'abantu ivyiyumvire, vyarakorewe abigishwa ba Yesu. Kandi bizongera bishike neza cane; kuko umutima uganzwa na kameremere urwanya ivyagezwe vy'Imana, kandi ntuzemera gutegekwa navyo. Isi ntiyitayeho amategeko ya Kristo uyu musi, nk'uko nyene itayitayeho mu misi y'intumwa. Rwa rwanko rwasunitse ka kamo ngo«Nabambwe! Nabambwe!» rumwe rwatumye

abigishwa bahamwa,n'ubu ruracakorera mu bana b'umugararizo. Ya mpwemu yaterera mw'ibohero abagabo n'abagore mu Bihe vy'Umwiza, mu buhungiro, no mu rupfu, yiyumviriye itotezwa rya Sentare y'Idini yacira imanza abatavuga rumwe n'Ishengero tya Roma, yateguye kandi igashira mu ngiro ubwicanyi bwo mu rusengero rwa Mweranda Barutolomeyo, kandi ikatsa imiriro y'i Simitifildi, n'ubu iracakora n'inkomezi z'ubugesera mu mitima y'intakebwa. Kahise k'ukuri kamye na ntaryo karangwa n'intambara iri hagati y'ukuri n'ikinyoma. Ubutumwa bwiza bwamye bwamamazwa muri iyi si hagati y'intambamyi, irinde, gutakaza, no kubabazwa.

Ni iki catera inkomezi abo muri kahise bahamwe ku bwa Kristo ? Bwari ubumwe n'Imana, ubumwe na Mpwemu Yera, ubumwe na Kristo. Agahahazo n'agahamo vyatandukanije benshi n'abagenzi babo bo kw'isi, ariko ntivyigeze bibatandukanya n'urukundo rwa Kristo. Umuntu asagirijwe n'imipfunda y'amageragezwa, ntiyigera akundwa n'Umukiza wiwe nk'igihe ari mu gahahazo ku bw'ukuri. «Nzomukunda,» niko Kristo yavuze, «kandi nzomwihishurira.» Yohana 14:21. Iyo kubara ukuri umwizera arengukijwe mu manza z'isi, Kristo ahagarara i ruhande yiwe. Iyo yugaraniwe mu mpome z'ibohero, Kristo aramwihishurira, agahumuriza umutima wiwe n'urukundo rwiwe. Igihe yishwe azira Kristo, Umukiza amubwira ati, Bahubora kwica umubiri, ariko ntibashobora kubabaza umutima. «Ni muhumure; Jewe naranesheje isi.» «Ntutinye, kuko ndi kumwe nawe, nzogutabara, mbere nzokuramira n'ukuboko kw'i buryo kw'ukugororoka kwanje.» Yohana 16:33; Yesaya 41:10. «Abizigiye [45]
Uhoraho bameze nk'umusozi Siyoni udashobora kunyiganyizwa, ariko wama ushimangiye gushitsa ibihe bidashira.

Nkuko imisozi ikikije Verusalemu, niko Uhoraho akikije abantu biwe, uhereye none, ugashitsa ibihe vyose.» «Azobacungura, abakize agahahazo, n'umuryano; Kandi amaraso yabo azoba ay'agaciro mu maso ziwe.» Zaburi 125:1-3; 72:14. Uhoraho Nyene ingabo azobakiranira;... Uhoraho Imana yabo azobakiza nk'umukuku, niwo bantu biwe; kuko bazoba nk'utubuyenge two ku gitsibo, dukayanganira hejuru y'igihugu ciwe.» Zekariya 9 :15,16.

## Ikigabane ca 9: Abakozi Indwi B'ishengero

*Iki kigabane Gishimikiye ku Vyakoze n'lntumwa 6:1-7.*

«Muri iyo misi, abigishwa bariko baragwira, Abayuda bavuye i Bugiriki bidodombera Abaheburayo b'inyamo, kuko abapfakazi babo birengagizwa ku ngaburo y'imisi yose.» Ishengero rya mbere ryari rigizwe n'abantu bava mu mirwi myinshi, n'amahanga atandukanye. Igihe c'isukwa rya Mpwemu Yera kuri Pentekote, «Hari Abayuda bamyeho, abagabo bubaha Imana, bari baravuye mu mahanga yose yo musi y'ijuru.» Ivyakozwe n'Intumwa 2:5. Muri abo bizeye bavuye mu Baheburayo bari bakoraniye i Yerusalemu, hari bamwe bari bazwi nk'Abagiriki, bamye bakebana n'Abayuda b'i Palestina uhereye kera, mbere bakanarwana.

Imitima y'abari bahindutse ku bw'ibikorwa vy'intumwa, yari yarorohejwe kandi yaranywanishijwe n'urukundo rw'Umukiza. Naho batiyumvirana neza hambere aho, bose babanye mu mahoro. Satani yari azi ko igihe cose ubu bumwe buzobandanya ata nkomezi azoronka zo kwankiriza iterambere ry'ubutumwa bwiza; agerageza gukoresha inyifato n'ivyiyumviro vya kera, yizeye ko muri iyo nzira ashobora kuzana amacakubiri mw'ishengero. Maze vyarashitse, uko abigishwa bakomeje kugwirirana, niko umwansi nawe yorohewe mu kuzana ukwikekana kwa bamwe kera bari bafise ingeso yo kugirira ishari bene wabo basangiye ukwizera, n'ukurondera amakosa mu barongozi, maze «Abayuda bavuye mu Bugiriki bidodombera Abaheburayo b'inyamo.» Inyanduruko y'imyidogo ngo ni uko abapfakazi b'Abayuda bavuye mu Bugiriki birengagizwa mu ngaburo ya buri musi. Gusumbanya abantu vyari kuba biteye kubiri n'ivyiyumviro vy'ubutumwa bwiza, ariko Satani yari yashoboye kuzana imyikeko. Ingingo zihutirwa rero zategerezwa gufatwa ngo bakureho intandaro yo kutanyurwa iyo ari yo yose, kugira ngo umwansi ntatsinde mu gikorwa ciwe co kuzana amacakubiri mu bizera.

Abigishwa ba Kristo bari bageze ahafiyerera mu kubaho kwabo. Bivuye ku burongozi bwiza bw'intumwa, bakorera mu bumwe barongowe n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera, igikorwa intumwa z'ubutumwa bwiza cariko kirakura vuba vuba. Ishengero ryakomeza gukura, kandi uku kwiyongera kw'abizera kwatumye imitwaro yiy- [46]
ongera ku barongozi. Nta muntu n'umwe, canke akagwi k'abantu, yari gushobora kubandanya kwiremeka iyo mitwaro wenyene, adataye mu kaga kazoza k'ishengero. Hari hakenewe ko bongera ku gabangana ibikorwa vyari vyakozwe mu butungane n'abantu bakeya mu misi ya mbere y'ishengero. Intumwa noneho zitegerezwa gutera intambwe ikomeye mu gutunganya uburongozi bw'igikorwa c'ubutumwa bwiza mw'ishengero, mu kuremeka abandi imitwaro bahora bikoreye ubwabo. Bakoranya abizera, intumwa ziyoborwa na Mpwemu Yera mu kugira integuro y'urutonde rwiza rwo gushira mu gikorwa abagize ishengero. Intumwa zivuga ziti, igihe kirageze, aho abarongozi mu vya Mpwemu bajejwe ishengero, boruhurwa umutwaro wo kugaburira aboro n'imitwaro isa n'iyo, ngo babone umwidegemvyo wo kwamamaza ubutupiwa bwiza. Bavuga bati, «Nuko bene Data,» «ni murabe muri mwebwe abantu indwi buzuye Mpwemu Yera n'ubwenge, tubashire kuri iki gikorwa. Ariko tweho tuzoshishikara gusenga no kugabura ijambo ry'Imana.» Iyi mpanuro yarakurikijwe, maze barasenga kandi barambika ibiganza ku bantu indwi batoranijwe, babashira i ruhande bose bakoranye, babashinga igikorwa c'abakozi b'ishengero.

Itorwa ry'abo bakozi b'ishengero indwi ngo bakurikirane ico igikorwa c'umwihariko, ryabaye ikimenyetso c'imigisha myinshi kw'ishengero. Abo bakozi baritwararitse ubukene bw'abantu ku giti cabo, bongera kandi bitwararika n'umutungo w'ishengero, kandi ku bwo kugenzurana ubwenge umutungo, n'akarorero kabo mu kwubaha Imana, babereye ubufasha bukomeye abarongozi bagenzi babo, mu gushira hamwe inyungu z'ishengero. Icerekana ko iyi ntambwe yari mu nteguro y'Imana, vyagaragajwe n'ingaruka nziza yaciye yibonekeza ubwo nyene. «Nuko ijambo ry'Imana riragwira; abigishwa barondoka cane i Yerusalemu, abaherezi benshi bumvira ukwizera.» Uyu mwimbu w'imitima washobotse hamwe kubera umwidegemvyo munini w'intumwa, ahandi naho ku bw' umwete n'ubushobozi vyagaragajwe na ba bakozi indwi. Kuba abo bakozi bashizwe i ruhande ku bwo igikorwa c'umwihariko co kwit-

wararika abakene, ntivyababujije kwigisha ukwizera. Ahubwo, bari bashoboye neza kwigisha abandi mu kuri, kandi bakoze ico gikorwa n'igishika cinshi kandi bararoranirwa.

Ishengero rya mbere ryari ryahawe igikorwa kidahengeshanya kwaguka-co gushinga ibigwati vy'umuco n'umuhezagiro, aho hose hari abantu b'intungane bemera kwitangira igikorwa ca Kristo. Kwamamaza ubutumwa bwiza vyategerezwa gushika mw'isi yose, kandi intumwa z'umusaraba ntizashobora kwitega ko zizoshika ku nshingano yazo kiretse zigumye mu bumwe bwa Kristo, gutyo zigahishurira isi ko ziri umwe na Kristo mu Mana. Mbega umurongozi
[47] wabo, akaba n'Imana, ntiyari yasavye Data, «Ubazigamire mw'izina ryawe, ngo babe umwe nk'uko natwe turi ?» Kandi nti yari yarabwiye abigishwa biwe ati,«Ab'isi barabanka, kuko mutari ab'isi ?» Mbega ntiyari yinginze Se ngo «bahingurwe babe umwe ?» «Ngo isi yizere ko ari wewe wantumye ?» Yohana 17:11, 12, 23, 21. Ubuzima bwabo n'ubushobozi bwabo mu vya Mpwemu vyari bihagaze ku migenderanire bafitaniye n'Umwe yabategeka kwigisha ubutumwa bwiza.

Abigishwa bashobora kwitega guherekezwa n'ubushobozi bwa Mpwemu yera n'ugukorana n'abamarayika bo mw'ijuru igihe babaye umwe na Kristo gusa. Bafashijwe n'ibi bikoresho vy'Imana bazoshobora guhagarara imbere y'isi nk'abasangiye urugamba, kandi bagatsinda intambara bategerezwa kurwana ubudahengeshanya, banyinyurana n'ubushobozi bw'umwiza.Hamwe bokomeza gukorera mu bumwe, intumwa zo mw'ijuru zabitangiye imbere zokwugururura inzira; imitima ikitegurira kwakira ukuri, kandi benshi boba iminyago ya Kristo. Igihe cose boguma mu bumwe, ishengero ryotera imbere ari «ryiza nk'ukwezi, rikayangana nk'izuba, riteye ubwoba nk'igitero c'ingabo zigendana amabendera.» Indirimbo 6:10. Nta na kimwe coribuza gutera rija imbere. Ishengero ryororanirwa rikava mu ntsinzi rija mu yindi, rishitsa inshingano yaryo yo kwamamaza ubutumwa bwiza, rirangwa n'ubwiza. Uburongozi bw'ishengero i Yerusalemu bwategerezwa kubera akarorero uburongozi bw'amashengero ahantu hose intumwa z'ukuri zizokwemeza abantu guhindukirira ubutumwa bwiza. Abahawe ibango ryo kurongora ishengero, ntibategerezwa gutwaza igitugu iragi ry'Imana, ahubwo, nk'abungere b'ubwenge, bategerezwa «kuragira ubusho bw'Imana... bakabera akarorero ubusho.» (1 Petero 5 :2,3); Kandi

abakozi b'ishengero bategerezwa kuba «abatagira umugayo, buzuye Mpwemu -Yera n'ubwenge.» Abo bantu bategerezwa guhagararira ukuri nk'umuntu umwe, kandi bakakugumya n'inkomezi n'ingingo. Gutyo rero bagakwegakwegera mu bumwe umukuku wose.

Hanyuma y'aho muri kahise k'ishengero rya mbere, igihe mu turere twinshi tw'isi imigwi myinshi y'abizera yari yagizwemwo amashengero, uburongozi bw'ishengero bwaratunganijwe neza kuruta, kugira ngo urutonde no kuja inama n'ingingo bitsimbatare. Umwizera wese yasabwa gukora uruhara rumwega. Umwe wese yategerezwa gukoreshanya ubwenge ingabire yahawe. Bamwe bari bafise ingabire za Mpwemu Yera zidasanzwe-» yabanje gushira mw'ishengero bamwe kuba intumwa, maze aba kabiri ibashiraho kuba abavugishwa nayo, maze aba gatatu, ibashiraho kuba abigisha, maze ishiraho abakora ibitangaza, maze ishiraho abahawe ingabire zo gukiza indwara, abahawe gufasha abandi, n'abahawe kurongora, n'abahawe kuvuga indimi nyinshi.» 1 Ab'i Korintol2 :28. Ariko iyi migwi yose y'abakozi itegerezwa gusenyera ku mugozi umwe. [48]
«Yamara hari ingabire z'uburyo bwinshi, ariko Mpwemu ni umwe. Kandi hari amabango menshi, ariko Umwami ni umwe. Kandi hari uburyo bwinshi bwo gukora, ariko Imana ni imwe, ikorera vyose muri bose. Yamara umuntu wese ahabwa ikimwerekanako Mpwemu, kugira ngo bigire ikimazi. Kuko umwe aheshwa na Mpwemu ijambo ryo kumenya, uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu ukwizera, uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu umwe ingabire zo gukiza indwara, uwundi agahabwa gukora ibitangaza, uwundi agahabwa kuvugishwa n'Imana, uwundi agahabwa kuvuga indimi nyinshi, uwundi agahabwa gusobanura indimi: ariko ivyo vyose uwo Mpwemu umwe niwe abikorera muri bo, agabira umuntu wese uko agomba. Nk'uko umubiri ari umwe ukagira ingingo nyinshi, kandi ingingo z'umubiri zose naho ari nyinshi ari umubiri umwe, ni ko na Kristo ari.» 1 Ab'i Korinto 12:4-12.

Igikorwa cahawe abahamagariwe kuba abarongozi mw'ishengero ry'Imana kw'isi kirahambaye cane. Mu gihe Imana ubwayo yiyoborera ishengero, Mose igihe yagerageza kwiremeka imitwaro wenyene, imitwaro iremereye ku buryo yari igiye kumuvuna, yagiriwe inama na Yetiro kugira integuro nziza yo gusabikanya ibikorwa. Yetiro yamubariye ati, «Ube ari wewe mushikirwa w'amajambo y'abantu wo kuyajana ku Mana,» «abe ari wewe ujana imanza zabo ku Mana:

kandi abe ari wewe ubigisha amabwirizwa n'ivyagezwe, no kubereka inzira bakwiye gucamwo, n'ibikorwa bakwiye gukora.» Yetiro yarongeye amuhanura ko atoranya mu bantu ngo babe abo «kuganza igihumbi-igihumbi, ijana-ijana, mirongo itanu, abandi cumi-cumi.» Basabwa kuba «abantu bashoboye, bubaha Imana, abanyakuri, banka ukwifuza.» Bategerezwa «gucira imanza abantu ibihe vyose,» ngo baruhure Mose umutwaro wo kwitwararika utuntu duto duto twari gukorwa n'abafasha biwe bafise ubwenge kandi bavyitangiye.

Umwanya n'inkomezi z'abantu, ku bw'integuro y'Imana, bashizwe mu bibanza vy'uburongozi mw'ishengero, bitegerezwa gukoreshwa mu bintu bikeneye ubwenge budasanzwe, n'umutima wagutse. Si integuro y'Imana ko abo bantu bahamagarwa ku tuntu duto duto abandi bashobora gukora. «Bakuzanire urubanza rugoye,» «ariko urubanza rwose

rutagoye, abe ari bo baruca ubwabo. Nuko, ni wabigenza utyo, Imana ikabikwemerera, bizogushobokera, n'abantu bose bazohora bataha i wabo ata mwikomo.» Ku bw'uwo mugambi, «Mose atoranya mu Bisirayeli bose abantu b'abahanga, abagira bakuru muri abo bantu, abaha kuganza abantu, bamwe igihumbi-igihumbi, abandi ijana-ijana, abandi mirongo itanu, abandi cumi-cumi. Nuko bacira abantu imanza ibihe vyose: imanza zigoye bazizanira Mose, ariko izitagoye bakazica ubwabo.» Kuvayo 18:19- 26.

[49] Inyuma y'aho, igihe Mose yatora abakuru mirongo indwi ngo basabikanye igikorwa c'uburongozi, yaritonze mu gutora abafasha biwe, abagabo biyubashe, bazi gushishoza, kandi b'inararibonye. Mu kubihanikiriza igihe abo bakuru bashirwa i ruhande, yarabagenekereje ibisabwa ku muntu ngo abe umurongozi w'ubwenge mw'ishengero. Mose ababarira ati: «Ni mwumvirize imanza za bene wanyu, mucire urw'ukuri umuntu na mugenzi we, canke umuntu avuganye n'umunyamahanga aba i wawe. Nti muze muce urwa nkunzi, ariko muze mwumvirize aboroshe n'abahambaye, mubanganye : Nti muze mutinye umuntu ku kigohe, kuko imanza ari iz'Imana.» Gusubira mu Vyagezwe 1:16,17. Umwami Dawidi, ikiringo c'ubwami bwiwe kigiye kurangira, yihanikirije abari bajejwe igikorwa c'Imana mu gihe ciwe. Akoraniriza i Yerusalemu «abaganwa bose b'Abisirayeli, abaganwa b'imiryango, n'abagabisha b'ingabo zigenda zikuranwa gusasa i

bwami, n'abagaba ibihumbi, n'abagaba amajana, n'abakuru bari bajejwe itunga n'amasho yiwe n'abana biwe, n'abantu b'inkone, n'abahizi, mbere n'abantu bose b'intore,» Uwo mwami ageze mu za bukuru abihanikiriza «imbere y'Abisirayeli bose, ari ryo koraniro ry'Uhoraho, n'Imana yacu iravyumva.» ati «mukwiye kwitondera ivyagezwe vyose vy'Uhoraho Imana yanyu.» 1 Ngoma 28:1,8.

Salomo, nk'uwahamagariwe igikorwa c'uburongozi, Dawidi yamwihanikirije mu buryo bw'umwihariko: «Nawe, mwana wanje Salomo, ukwiye kumenya Imana ya so, uyisabane umutima utunganye, kandi ukimze; kuko Uhoraho asuzuma imitima yose, akamenya imigabo yose, n'ivyiyumviro vyose. Ni wamurondera uzomubona, ariko ni wamuvako, azoguheba gushitsa ibihe vyose. Nuko rero wirinde, kuko ari wewe Uhoraho yatoye:... nuko, kovya, ukore.» 1 Ngoma 28:9,10. Izi ngingo z'ubugororotsi n'ubutungane zarongora abarongozi mu bwoko bw'Imana mu bihe vya Mose na Dawidi, zategerezwa gukurikizwa n'abahawe kurongora iryo shengero ry'Imana ryashinzwe mu gihe c'ubutumwa bwiza. Mu gikorwa co gushira urutonde mu mashengero yose, n'ugushira i ruhande abantu babereye ngo babe abarongozi, intumwa zisunze ingingo z'uburongozi ziboneka mw'Isezerano rya Kera. Bavuga bati umuntu ahamagariwe kuba umurongozi mw'ishengero «akwiye kutabako umugayo, nk'umubwiriza w'Imana nyene; kandi ntakwiye kuba uwudakurwa kw'ijambo, canke umusinzi, canke uwusugurirwa, canke umunywi wa vino, canke umusinzi, canke uwifuza inyungu mbi; ariko abe uwukunda gutanga indaro, akunda ivyiza, adahugumba, agororoka, yera, yirinda, agumya ijambo ryo kwizerwa rihura n'ukwigisha kwacu, kugira ngo abone guhanura abantu mu kwigisha kuzima no gutsinda abamuhaririza.» Tito 1:7-9.

Urutonde rwakurikijwe mw'ishengero Rukristo rya mbere, rwabashoboje kuja imbere n'inkomezi, bameze nk'ingabo zatojwe
indero nziza, zambaye ibirwanisho vy'Imana. Imirwi y'abizera, [50]
n'aho yari isanzaye mu karere kanini, bose bari ingingo z'umubiri umwe; bose bagenda mu bumwe bashize hamwe. Igihe ingorane zavuka mw'ishengero ry'intango, nk'uko vyashitse inyuma muri Antiyokiya n'ahandi hose, abizera ntibashobore kwumvikana, izo ngorane ntibareka ngo zizane ukwicamwo ibice, ahubwo baca babishira mu nama ya bose nk'umubiri w'abizera, igizwe n'abaserukira abandi mu mashengero atandukanye y'intango, irimwo intumwa

n'abashingantahe bajejwe kurongora abandi. Gutyo, inkomezi za Satani zo kurwanya ishengero mw'isanzare n'ukwigabura mu bihande bitandukanye, zaneshejwe no kubakoranya, imigambi y'umwansi yo gusanzaza no gusambura iba iratsinzwe.

«Imana si iy'umuvurungano, ariko ni iy'amahoro, nk'uko bimeze mu mashengero yose y'abera.» 1 Ab'i Korinto 14:33. Itegeka ko mu burongozi bw'ishengero vyose bikorwa mu rutonde ata kajagari, uyu musi nk'uko vyari muri kahise. Yifuza ko igikorwa cayo cokorwa n'ubwitonzi n'ubugororotsi buhanitse kugira ngo igishireko ikidodo ciwe co kucemeza. Umukristo, ategerezwa kuba umwe n'Umukristo, ishengero rikaba rimwe n'irindi shengero, abantu bakaba ibikoresho bikorana n'Imana, buri gikoresho kikisunga Mpwemu Yera, maze vyose bigakorana mu gushikanira isi inkuru nziza z'ubuntu bw'Imana.

## Ikigabane ca 10: Umukristo Wa Mbere Yapfiriye Ukwizera

*Iki kigabane gisliminikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 6:5-15; 7.*

Stefano, uwari imbere muri ba bakozi b'ishengero indwi, yari umuntu yubaha cane Imana, kandi w'ukwizera gukomeye. Naho yari Umuyuda, yaravuga ururimi rw'Ikigiriki kandi yari amenyereye imico n'imigenzo y'Abagiriki. Yaboneyeho rero akaryo ko kwigisha ubutumwa bwiza mu masinagogi y'Abayuda b'Abagiriki. Yari afise umwete mwinshi mu gikorwa ca Kristo, kandi yatangaza ukwizera kwiwe ashize amanga. Abize Ivyanditswe n'abigisha b'ivyagezwe baharira nawe ku mugaragaro, bizeye ko ata kabuza bamutsinda ata ngorane. Ariko «ntibashobora gutsinda ubwenge na Mpwemu Yera bimuvugisha.» Nti yavugana ubushobozi na Mpwemu gusa, ahubwo vyagaragaye ko yari yarize amajambo yabuwe n'abavugishwa n'Imana, kandi ko yize ibijanye n'ivyagezwe vyose. Yararwaniye ukuri yavugira afise ububasha, kandi atsinda abamurwanya. Yashitsweko na rya sezerano, «Nuko ibi mubishire ku mutima, yuko mudakwiye kubanza kwiyumvira ivyo muzokwireguza : kuko ari jewe nzobaha ururimi n'ubwenge, ivyo ababarwanya bose batazoshobora gutsinda canke gutururuza.» Luka 21:14,15.

Abaherezi n'abategetsi babonye ubushobozi bwaherekeza in- [51]
yigisho za Stefano, banigwa n'inzigo. Aho kwakira ivyemezo yatanze, bafata ingingo yo kuniga ijwi ryiwe mu kumwica. Kenshi bari barahaye ibiturire abategetsi b'Abaroma ngo bahumirize igihe Abayuda bifatiye mu miwe amategeko, bakagerageza gucira imanza no kwica abanyororo bakurikije imigenzo y'igihugu cabo. Abansi ba Stefano ntibakekeranije ko bashobora kandi gukora uko bishakiye ata nkomanzi. Bahitamwo kwigerezako, maze bafata Stefano bamuzana imbere ya Sentare Nkuru y'Abayuda ngo bamucire urubanza.

Abayuda bize bavuye mu bihugu bibanyi bahamagarirwa kuvuguruza uwo mufungwa. Sauli w'i Tarushishi niho yari kandi yari

arongoye abarwanya Stefano. Akoresha ubuhinga bw'imvuzi n' ubwenge bwo guhinyanyura amajambo bw'abigisha b'Ivyanditswe, ngo yemeze abantu ko Stefano ariko arigisha ibinyoma n'inyigisho zo kugumura ; ariko muri Stefano asangamwo umuntu yatahukiwe umugambi w'Imana mu kwamamaza ubutumwa bwiza mu mahanga yose. Kubera Abaherezi n'abategetsi batashobora guhangarana n'ubwenge n'ubwitonzi vya Stefano, bafata ingingo yo kumutangako akarorero; gutyo rero mu kunezereza agatima kabo kuzuye urwanko n'ukwihora, babuze abantu mu kubatera ubwoba, ntibemere inyigisho ziwe. Bahera ivyabona vy'ibinyoma ngo vyemeze ko vyumvise Stefano arogota ku rusengero n'ivyagezwe. Ivyo vyabona bivuga ngo «Twumvise avuga amajambo y'amarogotano kuri Mose no ku Mana,» n go «Yesu Umunyanazareti azosenyura aha hantu, kandi ahindure imigenzo twahawe na Mose.»

Ubwo Stefano yahagarara imbere y'abamucira urubanza ngo yishure ku kirego co kurogota, ugukayangana kwera kwagaragaye mu maso hiwe, maze «abicaye muri Sentare bose babona mu maso hiwe hasa n'aho umumarayika.» Benshi mu babonye uwo muco bahinda agashitsi, maze bifuka mu maso, ariko ubuhakanyi bw'intagondwa n'ivyiyumviro bigoramye vy'abategetsi ntivyahungabanye. Igihe Stefano yabazwa ngo yiregure, yatanguje ijwi ritomoye kandi rirenga, ryasamiraniye mu nyubakwa ya Sentare. Mu majambo yatangaje ikoraniro, yaciye ku mayange kahise k'ubwoko bwatoranijwe n'Imana. Yerekanye ubumenyi bukomeye bw'ivyandiswe vy'Abayuda, n'ubusobanuro bwavyo bwa Mpwemu, muri Lki gihe nk'uko vyasohoye muri Kristo. Yasubiyemwo amajambo Mose yavugishijwe yerekeye Mesiya: «Uhoraho Imana yanyu azobahagurukiriza uwuvugishwa na We ameze nka nje ava muri mwebwe, mu b'iwanyu: aze abe ari we mwumviriza.» Yarerekanye ko adatirimuka ku Mana no ku kwizera kw'Abayuda, ariko anabereka ko ivyagezwe Abayuda bizeye ku bwo agakiza bitashoboye gukiza Isirayeli gusenga ibigirwamana. Yafatanije Yesu Kristo na kahise kose k'Abayuda. Yarerekeje ku
[52] nyubako y'urusengero rwa Salomo, no ku majambo ya Salomo na Yesaya:«Yarnara Isumbavyose ntiba mu zubakishijwe amaboko nkuko uwavugishijwe n'Imana yavuze, ati Ijuru ni ryo ntebe yanje y'ubwami, isi nayo ni indava y'ibirenge vyanje: muzonyubakira

inzu ki ? Ni ko Uhoraho abajije, canke nzoruhukira ahantu ki ? Mbega intoke zanje si zo zaremye ivyo vyose ?»

Maze Stefano ageze ngaho, haduka induru mu bantu. Igihe yafatanya Kristo n'imburi z'abavugishwa n'Imana kandi akavuga ku vy'urusengero, umuherezi yigirisha nk'uwukubiswe n'inkuba ku bw'ayo majambo y'agacamutwe, yitantamurirako impuzu. Ku bwa Stefano iki cari ikimenyetso ko bidatevyye ijwi ryiwe rigiye kuzimangana burundu. Yabonye ingene amajambo yiwe yakiriwe nabi, kandi atahura ko yariko aratanga igishingantahe ca nyurna. Nubwo yari agejeje amajambo yiwe hagati, aca arasozera bukwi na bukwi. Ahagarika ivyo yariko aravuga kuri kahise yariko arakurikirana, ahindukirira abacamanza biwe banizwe n'ishavu, arasemerera ati: «Yemwe abatagondwa izosi, mwa ntakebwa mu mitima no mu matwi, na ntaryo murwanya Mpwemu Yera. Uko ba sogokuruza banyu bakora, niko namwe mukora. Ni nde mu bavugishijwe n'Imana basogokuruza banyu batahamye ? Bishe ababanje kumenyekanisha ivyo kuza kwa wa Mugororotsi, none namwe mwaramuguze muramwica: ari mwebwe mwahawe ivyagezwe bizanywe n'abamarayika, ntimwavyitondera.»

Abaherezi n'abakuru bavyumvise ishavu riraziriringa. Bifata nk'inyamaswa aho kwifata runtu, basimbira kuri Stefano bamuhekenyera imisaya. Uwo mufungwa abonye mu maso yabo y'ibirandamuke atahura ko ivyiwe birangiye; ariko ntiyahungabanye. Kuri we ubwoba bw'urupfu bwari bwayonze. Kuri we uburakari bw'abaherezi n'abanyagihugu nti vyamutera ubwoba. Ibiri imbere yiwe ntiyabihanga amaso. Kuri we inzugi z'ijuru zari zuguruye, maze araba yo, abona ubwiza bw'ibirimba vy'Imana, na Kristo, nk'uwuhagaze ava ku ntebe y'ubwami, yiteguye gushigikira umusuku wiwe. Stefano asemerera mu majambo y'intsinzi, ati«Ehe mbonye ijuru rikingurutse, n'Umwana w'umuntu ahagaze i buryo bw'Imana.»

Ubwo yerekana ubwiza bw'ivyo bintu amaso yiwe atangariye, abamuham.a ntibashobora kuvyihanganira. Biziba amatwi, ngo nti bumve amajambo yiwe, bayogora n'amajwi arenga, bamugwirako icarimwe, «bamuhindira inyuma y'igisagara.» «Bicisha Stepfano amabuye, yambaza Imana, avuga ati, Mwami Yesu akira ubugingo bwanje. Araheza arapfukama, asemerera n'ijwi rirenga, ati Mwami, ntubaharureko icaha. Amaze kuvuga atyo, aca aracikana.»

Nta ngingo y'ubutungane n'imwe yafashwe kuri Stefano, ariko abategetsi b'Abaroma bahawe igifukamunwa c'amahera menshi ngo ntibagire itohoza kuri ivyo bintu. Urupfu rwa Stefano rwakoze ku
[53] mitima y'ababibonye bose. Urwibutso rw' ikimenyetso c'Imana mu maso hiwe; amajambo yiwe yakoze ku mitima y'abayumvise, vyagumye mu bwenge bw'abari aho, bishingira intahe ukuri yatangaje. Urupfu rwiwe rwababaje ishengero, ariko rwatumye Sauli yizera, uwutashobora kwibagira ukwizera n'umutekano w'uyo mimtu yapfuye azira ukwizera kwiwe, n'ubwiza bwabonetse mu maso hiwe.

Mu rubanza n'urupfu vya Stefano, Sauli yasa n' uwafashwe n'ibisazi. Mu nyuma, yashavujwe n'ugutahura mw'ibanga ko Stefano ahawe icubahiro n'Imana kandi yatituwe n'abantu. Sauli yakomeje guhama ishengero ry'Imana, abahiga buhongo, abafata mu mazu yabo, kandi abashikiriza abaherezi n'abakuru ngo babafunge, mbere babice. Ubuhizi bwiwe muri aka gahamo bwateye ubwoba Abakristo i Yerusalemu. Abategetsi b'Abaroma nta kigoro kadasanzwe bakoze ngo bahagarike ico gikorwa c'ubwicanyi, mbere bafashije Abayuda mu mpisho kugira ngo babiyegereze kandi bikundwakaze kuri bo.

Inyuma y'urupfu rwa Stefano, Sauli yatowe ngo abe umwe mu bagize Sentare Nkuru y'Abayuda, baravye uruhara ruhambaye yagize muri urwo rupfu. Mu mwanya runaka yari igikoresho gikomeye mu minwe ya Satani, co kurwanya Umwana w'Imana. Ariko bidatevye, uyu yagize itoteza atiziganya yategerezwa gukoreshwa mu kwubaka iryo shengero yariko aratabagura. Uwuhambaye kuruta Satani yari yatoye Sauli ngo asubire mu kibanza ca Stefano yishwe azira ukwizera, ngo yamamaze ubutumwa bwiza kandi ababazwe ku bw'izina ryiwe, n'ugukwiragiza kure kandi mu turere twagutse, inkuru nziza y'agakiza kabonekera mu maraso yiwe.

## Ikigabane ca 11: Ubutumwa Bwiza I Samariya

*Iki kigabane Gishimikiye ku Vyakozwe n 'lntumwa 8*

Inyuma y'urupfu rwa Stefano, haduka agahamo ku bizera i Yerusalemu, gakomeye cane ku buryo «bose basabagiye mu bihugu vy'i Yudaya n'i Samariya.» Sauli «yatikiza ishengero, yinjira mu mazu yose, agakuramwo abagabo n'abagore, akabashira mw'ibohero.» Mu bihe vyakurikiye yavuze ku vyerekeye ico gikorwa c'ubwicanyi, ati: «Nanje ubwanje nahora niyumvira muri jewe yuko nkwiye gukora vyinshi birwanya izina rya Yesu Umunyanazareti. Ivyo ni vyo narabikora nyene ndi i Yerusalemu: kandi ngashira abera mu mabohero... No mu masinagogi yose, nabahana kenshi, nkagerageza cane kubatukisha Yesu; kandi kuko nasazwa cane mbazira, narabatuza no gushitsa mu bisagara vy'abanyamahanga.» Kuba Stefano atari we wenyene gusa yishwe, bibonekera no mu majambo ya Sauli ubwiwe, «Kandi igihe babica, nemeranya nabo.» Ivyakozwe n'Intumwa 29:9-11.

Muri ako kanya haza Nikodemu, atinya kwerekana ko yizera [54]
Umukiza yabambwe. Nikodemu yari umwe mu bari bagize Sentare Nkuru y'Abayuda, kandi we n'abandi yari yarakozwe ku mutima n'inyigisho ya Yesu. Kubera yari yarabonye ibikorwa bitangaje vya Kristo, vyari vyaramwinjiye mu bwenge ko Uwo yari Uwarungitswe n'Imana. Ku bwo icubahiro yatinya kugaragaza ko yemera uwo Mwigisha w'Umunyagalilaya, aza kuri We mu mpisho. Muri ico kiganiro Yesu yari yamuhishuriye umugambi w'agakiza n'igikorwa camuzanye mw'isi; ariko Nikodemu yari yakomeje gutinya. Yagumije ukuri mu mutima wiwe, kandi mu myaka itatu haribonekeje umwimbu muto. Ariko Nikodemu nti yari yemangiye Kristo ku mugaragaro, yari yagerageje muri Sentare Nkuru y'Abayuda kubuza abaherezi gushitsa imigambi yabo yo kumwica. Igihe noneho Kristo yamanikwa ku musaraba, Nikodemu yibutse amajambo yari yavuze muri wa mubonano wo mw'ijoro ku Musozi wa Mizeyituni, «Uko

Mose yamanitse inzoka mu bugaragwa, niko Umwana w'umuntu akwiye kumanikwa,» maze abona muri Yesu Umucunguzi w'isi.

Nikodemu, afatanije na Yosefu w'i Arimatiya, batanze uburyo bwose bukenewe bwo gushingura Yesu. Abigishwa bari batinye kwiyerekana ko ari abakurikiye Kristo, ariko Nikodemu na Yosefu bari baje kubafasha badatinya. Ubufasha bw'aba bagabo b'abatunzi bwari bukenwe muri ico gihe c'umwiza. Bari bakoreye Umwami wabo yapfuye, ico abo bigishwa b'abakene batari gushobora gukora; kandi ubutunzi n'ijunja ryabo vyari vyabakingiye, ku ruhande runini, ubwicanyi bw'abaherezi n'abategetsi. Igihe rero Abayuda bariko bagerageza kunigira mu menshi iryo shengero ry'uruhinja, Nikodemu yaje kurirwanira. Ubu hoho nta kwigengesera canke kubaza ibibazo, yateye intege ukwizera kw'abigishwa kandi akoresha ubutunzi bwiwe mu gushigikira ishengero i Yerusalemu, no mu guteza imbere igikorwa c'ubutumwa bwiza. Ba bandi mu yindi misi bamuha icubahiro, ubu baramutwenga kandi bakamuhama, maze ahinduka umworo mu vy'iyi si; ariko ntiyacitse intege mu kurwanira ukwizera kwiwe. Agahamo kaje kw'ishengero ry'i Yerusalemu katumye igikorwa c'ubutumwa bwiza gitera imbere. Igikorwa co kwigisha Ijambo ry'Imana cararoraniwe muri ico kibanza, kandi hari ingorane ko abigishwa banezerezwa no kuhakorera igihe kirekire, bakibagira itegeko ry'Umukiza ryo kugenda mw'isi yose. Bibagiye ko inkomezi zo kurwanya ikibi ziri mu gukora igikorwa n'ubwira bwinshi, batangura kwiyumvira ko ata gikorwa gihambaye bari bajejwe gukora, kiruta ico gukingira ishengero muri Yerusalemu ibitero vy'umwansi. Mu kiringo co kwigisha abizera basha ngo bajane ubutumwa ku batarabwumva, bari mu kaga ko guhava bafata ingendo yo kunyurwa n'igikorwa bari bakoze. Kugira ngo ivyariho vyayo bisanzare mu mahanga, aho bashobora gukorera abandi, Imana yaretse
[55] agahamo kabazako. Abigishwa birukanwa i Yerusalemu, «bagenda ahantu hose bigisha ijambo.»

Muri bamwe Umukiza yari yahaye itegeko, «Ni mugende, mwigishe amahanga yose» (Matayo 28:19), hari benshi bavuye mu bantu boroheje-abagabo n'abagore bari bize gukunda Umwami wabo, kandi bahisemwo gukurikira akarorero kiwe ko gukorera abandi. Abo boroheje, hamwe n'abigishwa bari barabanye n'Umukiza mu gihe c'igikorwa ciwe kw'isi, bari bahawe ibango rikomeye. Basabwa kujana kw'isi inkuru nziza y'agakiza kaboneka

muri Kristo. Igihe basanzara ku bwo agahamo bagiye buzuye umwete wo kwamamaza ubutumwa bwiza. Batahuye ico igikorwa cabo cabasaba. Bamenye ko bafise mu minwe umukate w'ubugingo wo guhembura isi yishwe n'inzara; kandi bagoberwa n'urukundo rwa Kristo ngo bagaburire uwo mukate abo bose bawukeneye. Umwami yakorera muri bo. Aho baja hose, abarwayi barakizwa kandi aboro bakigishwa ubutumwa bwiza.

Filipo, umwe muri ba bakozi b'ishengero indwi, yari muri abo batujijwe i Yerusalemu. «Aramanuka, aja mu gisagara c'i Samariya, abamenyesha ivya Kristo. Maze abantu benshi bashira umutima ku vyo Filipo avuga bashize hamwe, bumvise kandi babonye ibitangaza akora. Kuko impwemu nyinshi zihumanye... zabavamwo: kandi n'abari bamugaye, n'abacumbagira benshi barakizwa. Haba umunezero mwinshi muri ico gisagara.» Ubutumwa bwa Kristo ku Musamariyakazi bavuganye kw'iriba rya Yakobo bwari bwamye ivyamwa. Amaze kwumviriza amajambo yiwe, uwo mugore yari yagiye ku bantu bari mu gisagara, ati,«Ni muze murabe umuntu ambariye ivyo nakoze vvyose: Ntiyoba ari we kristo? Bajana na we, barumviriza Yesu, baramwizera. Kubera bashaka kwumva ibindi vyinshi, bamusaba ngo agumane nabo. Amarana nabo imisi ibiri, «hizera abandi benshi baruta aba mbere kuko biyumviye ijambo ryiwe.» Yohana 4:39,41.

Kandi igihe abigishwa batuzwa i Yerusalemu, bamwe baronse i Samariya ubuhungiro. Abanyasamariya bakiriye abo bantu bazanye ubutumwa bwiza, kandi abizeye bavuye mu Bayuda baronka umwimbu ukomeye muri bamwe hambere bari abansi babo kuruta abandi. Igikorwa ca Filipo i Samariya cazanye ivyamwa vyinshi, maze, bimutera intege zo guhamagaza i Yerusalemu ngo baze kumufasha. Intumwa noneho zitahura neza ubusobanuro bw'amajambo ya Kristo, «Muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu, n'i Yudaya hose, n'i Samariya, no gushitsa ku mpera y'isi.» Ivyakozwe n'Intumwa 1:8.

Igihe Fihpo yari akiri i Samariya, yarongowe n'intumwa yo mw'ijuru «kuja i bumanuko, gushika ku nzira iva i yerusalemu ikaja i Gaza... Maze ava hasi aragenda.» Ntiyabajije ikibazo ku bw'uwo muhamagaro, canke ngo ahigimange; kuko yari yarize kudatirimuka ku bugombe bw'Imana. «Haza Umunyetiyopiya, inkone y'ububasha [56]
bwinshi yakorera Kanidake, umwamikazi w'Abanyetiyopiya, niwe

yazezwa itunga ryiwe ryose, yari yagiye i Yerusalemu gusenga. Yahindukiye yicaye mu mukogote wiwe ukwegwa n'amafarasi, asoma muri Yesaya yavugishwa n'Imana.»

Uyu Munyetiyopiya yari umuntu w'icubahiro n'ububasha. Imana yabonye ko ni yahinduka azoshira abandi umuco yaronse, kandi ko azofasha ubutumwa bwiza kwamamara ku bw'ububasha bwiwe. Abamarayika b'Imana bari kumwe n'uwo muntu yarondera umuco, kandi yarazanywe kuri Kristo. Ku bw'igikorwa ca Mpwemu Yera, Uhoraho yamuzaniye umuntu ashobora kumuyobora ku muco. Filipo yayobowe kuri uwo Munyetiyopiya ngo amusobanurire amajambo y'uwavugishwa n'Imana yariko arasoma. Mpwemu amubarira ati, «ni wegere urya mukogote, ugendane na wo.» Filipo yegereye, abaza iyo nkone ati, «ivyo usoma urabitahuye? Nawe ati nobishobora nte, ntabonye uwubindongoramwo? Yinginga Filipo ngo yurire bicarane.» Ivyanditswe yariko arasoma zari imburi z'uwavugishwa n'Imana Yesaya zerekeye Kristo. «Nk'uko umwagazi w'intama utekerereza imbere y'uwukemura, niko atakuyeko umunwa: Hamwe yacishwa bugufi barenganye urubanza rwiwe, ab'urunganwe rwiwe ninde azoshobora kubadondora? Kuko ubugingo bwiwe bukuwe mw'isi.» Iyo nkone ibaza Filipo iti,«ndakubaza: Uwavugishwa n'Imana yavuze aya majambo kuri nde? Niwe yayivuzeko canke yavuze ku wundi?» N'uko Filipo ateranura akanwa atangurira kuri ivyo vyanditswe, «amubwira ubutumwa bwiza bwa Yesu.» Umutima w'uyo mugabo wuzuye igishika cinshi ubwo yasobanurirwa ivyanditswe; uwo mwigisha ahejeje, aba yiteguye kwakira umuco yahawe. Nti yitwaje icubahiro ciwe c'isi ngo yanke kwakira umuco. «Bakigenda mu nzira, bashika ahari amazi: iyo nkone iramubaza iti, Ehe amazi; ikimbuza kubatizwa ni iki? Filipo arayishura ati, Namba wizeye mu mutima wawe wose birashoboka. Nayo iti Nizeye Yesu Kristo ko ari Umwana w'Imana. Ivuga ko bahagarika umukogote, baramanuka baja mu mazi bompi, Filipo n'iyo nkone, arayibatiza.

«Bavuye mu mazi, Mpwemu w'Umwami Imana ajana Filipo, inkone ntiyasubira kumubona, maze ishishikara kugenda inezerewe. Ariko Filipo abonekera muri Azoto: ahita avuga ubutumwa bwiza mu bisagara vyose, kugeza aho yashikiye i Kayisariya.» Iyi nkone yaserukiye umugwi munini w'abantu bakeneye kwigishwa n'abatwarabutumwa bameze nka Filipo-Abantu bazokwumva ijwi

ry'Imana bakaja aho abatumye. Hari benshi bariko barasoma Ivyanditswe Vyera badashobora gutahura akamaro kavyo k'ukuri. Hose mw'isi hari abagabo n'abagcre bariko bararangamiza mw'ijuru n'inyota nyinshi. Amasengesho n'amarira n'ubushakashatsi biva mu mitima biduga mw'ijuru, birondera umuco, ubuntu, Mpwemu Yera. [57]
Benshi bari ku nkengera y'ubwami, barindiriye gusa kwinjizwa. Umumarayika yarongoye Fihpo ku muntu yarondera umuco kandi yari yiteguye kwakira ubutumwa bwiza, kandi uyu musi abamarayika bazoyobora ibirenge vy'abakozi bazemerera Mpwemu Yera kweza indimi zabo no gutunganya imitima.

Uwo mumarayika yarungitswe kwa Filipo yari gukora ico gikorwa wenyene ku bw'uwo Mimyetiyopiya, ariko uku si ko Imana ikora. Umugambi wayo ni uko abantu bakorera abantu nkabo. Iragi ryahawe abigishwa bambere, abizera muri buri runganwe bararishikanye ku bandi. Umuntu wese yahawe ubutumwa bwiza yahawe ukuri kwera ngo agushikirize isi. Abantu b'Imana b'abizigirwa bamye ari abatwarabutumwa b'inshigwarimenetse, bahebera ubutunzi bwabo icubahiro c'izina ryayo, kandi bakoresha neza ingabire zabo mu gikorwa cayo. Igikorwa kitagiramwo ukwikunda Abakristo bakoze muri kahise, gitegerezwa kutubera icigwa n'ukuduha ivyiyumviro. Abagize ishengero ry'Imana basabwa kuba abahizi b'ibikorwa vyiza, bitandukanya ivyo ab'isi baharanira, kandi bakagera ikirenge mu ciwe, We yagenda hose akora ivyiza. Bategerezwa kuba buzuye imitima y'ikigongwe n'impuhwe bagafasha abakeneye ubufasha, bamenyesha abanyavyaha urukundo rw'Umukiza. Igikorwa nk'iki gikeneye abakozi bacihebera, ariko kandi kizana impembo nyishi. Abacinjiramwo bafise imitima igororotse bazobona imitima yahindukiriye Kristo, kuko ubushobozi buherekeza ico gikorwa c'Imana ntawobuhangara. Igikorwa co gutwara ubutumwa nticahawe abapasitori bashizwe i ruhande bonyene. Umuntu wese yakiriye Kristo ahamagariwe gukora ku bw'agakiza k'abandi bantu. «Mpwemu bo na wa mugeni barahamagara, bati Ngwino. Kandi uwumva n'ahamagare ati, Ngwino.» Ivyahishuriwe Yohana 22:17. Igikorwa co gutanga ubu butumire cahawe ishengero ryose. Uwo wese yumvise ubu butumire, asabwa kubwamamaza mu misozi no mu biyaya, avuga ati, «Ngwino.»

Ni akaga kwiyumvira ko igikorwa co gukiza imitima kiri ku gatwe k'abapasitori gusa. Umwizera yoroheje yitanze, Nyene uruz-

abibu akamuremeka umutwaro w'imitima, ategerezwa gushigikirwa n'abo Umwami yashinze ibikorwa bihambaye kuruta. Abo bahagaze nk'abarongozi mw'ishengero ry'Imana bategerezwa gutahura ko Igikorwa c'Umukiza cahawe abantu bose bizeye izina ryiwe. Imana izorungika mu ruzabibu rwayo abantu benshi batashinzwe igikorwa barinze kurambikwako ibiganza.

Amajana n'amajana, ego, ibihumbi n'ibihumbi, bumvise ubutumwa bw'agakiza, baracareze amaboko barindiriye uwobaha igikorwa, kandi bategerezwa kuba bariko barakora mu buryo ubwo aribwo bwose. Abo Kristo ababwira ati, «kubera iki mwicaye hano umusi wose ataco mukora ?» kandi arongera ati, «Namwe ni mungire
[58] mu ruzabibu.» Matayo 20:6,7. Kubera iki hari benshi bataritaba uwo muhamagaro? Ni kubera biyumvira ko bimiriwe kuko badahagarara ku ruhimbi? Ni batahure ko hanze y'uruhimbi hari igikorwa gihambaye ibihumbi n'ibihumbi vy'abakorerabushake bitanze bashobora gukora. Imana yararindiriye kuva kera ko umutima wo gukora winjira mw'ishengero ryose, ngo umuntu wese akore bivanye n'ingabire yiwe. Iyo abagize ishengero ry'Imana bakoze igikorwa bashinzwe mu mirima ikenye yo mu gihugu canke hakurya y'amazi, ngo bitabe umuhamagaro w'ubutumwa bwiza, isi yose izoburirwa, kandi Umwami Yesu azoca aza kuri iyi si afise ububasha n'ubwiza. «Ubu butumwa bwiza bw'ubwami buzovugwa mu mahanga yose, ngo bube ikimenyetso kibere icabona amahanga yose, maze umuhero uzoca uza.» Matayo 24:14.

## Ikigabane ca 12: Uwahoze Ahama Abakristo Ahinduka Umwigishwa Wa Kristo

*Iki Kigabane Gishitnikiye ku Vyakozwe n'lntumwa 9:1-18.*

Mu barongozi b'Abayuda bahindutse ku bw'intsinzi yagaragaje igikorwa c'ubutumwa bwiza, harimwo Sauli w'i Taruso. Umuroma w'inyamo, Sauli yari kandi Umuyuda w'amavuko kandi yari yigiye i Yerusalemu ku birenge vy'umwigisha rurangiranwa. «Ndi uwo mu bwoko bwa Isirayeli, ndi uwo mu muryango wa Benyamini,» Sauli, yari «Umuheburayo mu Baheburayo; ku vyo gushimikira ku vyagezwe, ndi Umufarisayo; Ku vy'ishaka nahama ishengero; ku vyo ukugororoka kuzanwa n'ivyagezwe, nta wabonye ico angaya.» Ab'i Filipi 3:5, 6. Yabonwa n'abigisha b'ivyanditswe nk'umusore afise kazoza kuzuye ivyizigiro, kandi babona muri we umuntu ashoboye kandi w'intwari mu kurwanira ukwizera kwa kera. Kuduzwa kwiwe ngo abe umwe mu bagize inama ya Sentare Nkuru y'Abayuda kwamuhaye ububasha bwinshi.

Sauh yari yagize uruhara rukomeye mu rubanza rwa Stefano, kandi ivyemezo ntahinyuzwa vyerekana ko Imana yari kumwe n'uwo muntu yazize ukwizera, vyatumye Sauli akekeranya ubugororotsi bw'igikorwa yari yarihaye co kurwanya abigishwa ba Yesu. Ubwenge bwiwe bwarahungabanye. Abuze ayo acira n'ayo amira yitabaza abo yari yizeye ko bafise ubwenge n'ubushishozi. Ubusobanuro bw'abaherezi n'abategetsi, amaherezo bumwemeza ko Stefano yari umurogosi, kandi ko Kristo uwo mwigishwa yapfuye azira yari umuhumvyi, kandi ko abakorera ahera bategerezwa kuba bari mu kuri. Nti vyoroheye Sauli gushika kuri iyi ngingo. Ariko amaherezo, amashure yiwe n'ivyiyumviro yari yarishizemwo, icubahiro yaha abigisha biwe ba kera, n'ubwibone buvuye ku gushimagizwa na bose, vyamuteye kurwanya ijwi ry'umutimanama n'ubuntu [59]
bw'Imana. Amaze guhitamwo neza ko abaherezi n'abanditsi b'ivyagezwe bari mu kuri, Sauli yongereje inkomezi mu kurwanya inyigisho z'abigishwa ba Kristo. Igikorwa ciwe co gushengeza

abagabo n'abagore beranda imbere y'ubucamanza, aho bamwe bacirwa urwo gufungwa abandi mbere urwo gupfa, kubera gusa bizeye Kristo, vyazanye umubabaro n'agahinda kuri iryo shengero ryari riherutse gushingwa, bituma benshi barondera ubukiriro mu guhunga.

Abatujijwe i yerusalemu n'agahamo «bagenda hose bavuga ijambo ry'Imana.» Ivyakozwe n'Intumwa 8:4. Kimwe mu bisagara bagiyemwo ni Damasiko, aho uko kwizera gusha kwakiriwe n'abantu benshi. Abaherezi n'abategetsi bari bibwiye ko ku bwo ubugenduzi bwiza n'agahamo ruhasha izo nyigisho z'ibinyoma zizozimangana. Ubu rero babona ko bikenewe ko bajana mu tundi turere ingingo bafatiye izo nyigisho nsha. Ku bwo igikorwa kidasanzwe bifuza gukorera i Damasiko, Sauh ati, tuma jewe. «Akigenda afuhagira, afitiye abigishwa b'Umwami imihigo y'ubwicanyi,» «aja ku muherezi mukuru, amusaba ivyete vyo guha ab'amasinagogi y'i Damasiko, kugira ngo ni yabona abantu bakurikiye Yesu, ari abagabo canke abagore, abajane i Yerusalemu mu ngoyi.» Gutyo, «Amaze guhabwa ubushobozi n'abaherezi,» Sauli w'i Taruso, yuzuye inkomezi z'ubusore, kandi arurumba umuriro w'ishaka ry'ikinyoma, ahaguruka afata urugendo rutazibagiranwa, agiye guhura n'ibintu bidasanzwe bizohindura ubuzima bwiwe bwose. Ivyakozwe n'Intumwa 26:12.

Ku musi wa nyuma w'urugendo rwiwe, «mu gicamusi,» ubwo izo ngenzi zirushe zegereza Damasiko, bashika aho bashobora kubona neza ako karere kanini k'isi imera, uturima duteye igomwe, uturima tw'ivyamwa, tuvomererwa n'imigezi y'akayaga itemba iva mu misozi ihakikuje. Inyuma y'urugendo rurerure mu bugaragwa, ivyo bintu mu vy'ukuri vyabazaniye intege nsha. Igihe Sauh n'abamuherekeje bariko basamarira ico kiyaya gitotahaye n'igisagara ciza hepfo yaho, «nk'uko abivuga hanyuma,» haza «umuco, ukayangana irya n'ino, twe n'abo tugendanye,» Ivyakozwe n'Intumwa 26:13, ukayangana ku buryo ata maso y'umuntu yoshobora kuwuhangara. Yikubita hasi nk'uwapfuye, yahumye.Uwo muco ukibandanya kurabagirana i ruhande yabo, Sauh yumva ijwi rivuga ... mu rurimi rw'Igiheburayo» Ivyakozwe n'Intumwa 26:14 ngo «Sauh, Sauli, umpigira iki? Nuko nanjfe ndabaza, nti Uri nde ga Mwami? Aranyishura, ati Ndi Yesu, uwo uriko urahiga: Erega birakugoye gutera imigere ku mihunda.» Agira ubwoba, asa n'uwabaye im-

punyi ku bw'uwo muco ukaze cane, bagenzi ba Sauh bumva ijwi, ariko nti bagira umuntu babona. Ariko Sauh we yumvise amajambo yavuzwe, kandi ahishurirwa neza uwayavuze-Umwana w'Imana [60] ubwiwe. Muri Uwo muntu w'ubwiza yari ahagaze imbere yiwe abona Umwe yabambwa.

Ku mutima w'uwo Muheburayo yabaye intere, ishusho y'Umukiza yiyanditse burundu. Amajambo yavuzwe yinjiye mu mutima yuzuye inkomezi ziteye ubwoba. Mu vyumba vy'umutima wiwe wuzuye umwiza haseseka umuco w'isegenya, uhishura ubutamenya n'ikosa vy'ubuzima bwiwe bwahise, n'ubukene noneho bw'umuco wa Mpwemu Yera. Sauli yaciye atahura ko mu guhama abigishwa ba Yesu mu vy'ukuri yariko arakora igikorwa ca Satani. Yabonye ko ivyo yiyumvira ko ari ukuri, n'igikorwa yakora vyari bihagaze ku ruhande runini ku kwizera yari yashize mu baherezi n'abategetsi. Yari yabemeye igihe bamubarira ko inkuru y'izuka bwari ubuhendanyi bw'abigishwa. Ubu noneho ko Yesu yamwiyeretse Ubwiwe, Sauh yemeye ko ivyo abigishwa bavuga ari ukuri.

Muri iyo saha y'imurikirwa ryo mw'ijuru, ubwenge bwa Sauli bwakoze ningoga. Amajambo yanditswe n'abavugishwa n'Imana yaciye ayatahura. Yabonye ko ukwankwa n'Abayuda, ukubambwa kwiwe, izuka n'ukuduga kwiwe mw'ijuru vyari vyarabuwe n'abavugishwa n'Imana, kandi ko vyamwemeza nka Mesiya yari yarasezeranywe. Insiguro ya Stefano igihe yapfa azira ukwizera kwiwe, yakubise ku mutima wa Sauli, kandi atahura ko vy'ukuri uwo muntu koko yari «yabonye ubwiza bw'Imana» igihe yavuga ati, «Ehe mbona ijuru rikingurutse, n'Umwana w'Imana ahagaze i buryo bw'Imana.» Ivyakozwe n'Intumwa 7: 55, 56. Abaherezi bari bavuze ko ayo majambo yari amarogotano, ariko Sauh noneho yatahuye ko ari amajambo y'ukuri. Mbega ihishurirwa ryahawe uwahoze ahama abakristo! Ubu rero Sauli yamenye adakekeranya ko Mesiya yasezeranywe yari yaje kw'isi, ari Yesu Umunyanazareti, kandi ko banse kumwakira, kandi akabambwa n'abo yaje gukiza. Yamenye kandi ko Umukiza yari yazutse n'intsinzi, kandi akaduga mw'ijuru. Ico gihe Imana yamuhishurira, Sauli yibutse afise ubwoba bwinshi ko Stefano, uwari yashingiye intahe Umukiza yabambwe kandi akazuka, yari yishwe nawe nyene yavyemeye, kandi hanyuma, bivuye kuri we abandi bigishwa ba Yesu b'ukuri bapfuye ku bw'agahamo gakomeye.

Umukiza yari yavuganye na Sauli abicishije muri Stefano, uwo ivyiyumviro vyiwe bitomoye bitashobora kuvuguruzwa. Uwo Muyuda yize cane yari yabonye mu maso h'uwo yapfiriye ukwizera, umuco w'ubwiza bwa Kristo-hasa «n'ah'umumarayika.» Ivyakozwe n'Intumwa 6:15. Yari yabonye ukwihangana kwa Stefano imbere y'abansi biwe, n'ingene yababababariye. Yari yabonye kandi ukwihanganira imibabaro n'umunezero wa benshi vyari vyatumye bababazwa kandi bagahahazwa. Yari yabonye na bamwe batanga ubuzima bwabo banezerewe ku bwo kwizera kwabo. Ibi bintu vyose vyari vyakoze cane kuri Sauli, kandi mu bihe bimwe vyasa
[61] n'ivyanditse mu bwenge bwiwe icemezo ntabanduka, ko Yesu yari Mesiya yasezeranywe. Mu bihe nk'ivyo yari yararwanye ijoro ryose n'ico cemezo, kandi igihe cose yari yaruhiye kwemera ko Yesu atari Mesiya, ahubwo ko abigishwa biwe ari intagondwa zataye umutwe.

Ubu hoho Kristo yari yavuganye na Sauh n'ijwi ryiwe bwite, ati «Sauh, Sauh, umpamira iki?» kandi iki kibazo ngo «Uri nde, ga Mwami?» cari cishuwena rya jwi nyene «Ndi Yesu uriko urahiga.» Kristo yishushanya ng'aha n'abantu biwe. Mu guhama abigishwa ba Yesu, Sauh yari yahangaye Umwami w'ijuru wenyene ubwiwe. Mu kubarementaniriza no kubashengeza, yari yarementanishirije kandi yashengeje Umukiza w'isi. Uwo muco ukayangana uhavuye, maze Sauh akava hasi, yasanze atakibasha kubona. Ugukayangana k'ubwiza bwa Kristo kwari kwarengeye amaso yiwe y'umubiri upfa; maze kumaze kumuvako, umwiza w'ijoro uca wuzura mu maso hiwe. Yizeye ko urwo ruhumyi rwari igihano kivuye ku Mana kubera yahiga bunyamaswa abigishwa ba Yesu. Aca yinjira mu mwiza w'icuraburindi, maze abo bari kumwe bagira ubwoba baratangara, «bamufata ukuboko bamujana i Damasiko.»

Mu gitondo c'uwo musi ivyo vyabereyeko, Sauh yari yegereje Damasiko, yirya akara kubera icizere umuherezi mukuru yari yamushizeko. Yari yahawe amabanga akomeye cane. Yari yashinzwe guteza imbere inyungu z'idini y'Ikiyuda, mu guhagarika namba bishoboka, iterambere ry'uko kwizera gusha i Damasiko. Yari yarahize ko umugambi wiwe uzotahana intsinzi, kandi yari anyotewe kubona ko ivyo yiteze bishika. Ariko, aho kubona ivyo yari yiteze, yinjiye ate mu gisagara? Yinjiye ari impumyi, yihebuye, anigwa n'umutima umurega, atazi ikindi gihano aziganirijwe, arondera inzu ya Yuda umwigishwa, aho, mu bwiherero, yari afise

akaryo kisanzuye ko kwiyumvira no gusenga. Sauh yamaze imisi itatu «ari impumyi, kandi ntiyagira ico arya canke anywa.» Iyo misi y'agahinda k'umutima, kuri we yabaye nk'imyaka. Yama na ntaryo yibuka, afise agahinda kenshi, uruhara yagize mu rupfu rwa Stefano. Yiyumviranye ubwoba icaha yakoze mu kureka ngo ategekwe n'ububisha n'ivyiyumviro bigoramye vy'abaherezi n'abategetsi, kandi yabonye mu maso ha Stefano hakayangana n'ubwiza bwo mw'ijuru. Yibutse n'akababaro n'umutima umenetse ibihe vyinshi yihumye amaso, akiziba amatwi imbere y'ivyemezo bigaragara, kandi agakomeza guhiga abizera Yesu Umunyanazareti.

Iyi misi yo kwigenzura n'ukwiyorosha mu mutima yayimaze ari wenyene. Abizera bari bagabishijwe ku mu gambi wa Sauli i Damasiko, batinya ko yoba yigirisha kugira ngo abahende, bamuguma kure, banka kumwiyegereza. Nti yashaka kwiyambaza Abayuda batizera, abo yari yifatanije nabo mu guhiga abizera; kuko yari azi ko badashobora kwumviriza inkuru yiwe. Vyasa nk'uko abantu bose bari bamuteye umugongo. Ivyizigiro vyiwe [62]
vyari bisigaye ku Mana y'imbabazi gusa, niko kuyiyambaza n'umutima umenetse. Ayo masaha menshi Sauli yamaze yiyugaranye ari kumwe n'Imana yo nyene, yibutse amajambo menshi y'Ivyanditse yerekeye umuzo wa mbere wa Kristo. Asubiramwo yitonze ayo majambo y'abavugishwa n'Imana, ivyiyumviro vyiwe vyuzuye icemezo cari ciziziye umutima wiwe. Ubwo yiyumvira ku busobanuro bw'ayo majambo y'imburi, atangazwa n'ubuhumyi yahoranye bwo kudatahura, n'ubuhumyi bw'Abayuda muri rusangi, bwari bwamutumye kwanka kwakira Yesu nka Mesiya yari yarasezeranywe. Ku bw'amaso yiwe amurikiwe, vyose vyaragaragaye. Yamenye ko ivyiyumviro vyiwe vya kera vyari bigoramye, n'ukutizera kwiwe vyari vyahumye amaso yiwe ya Mpwemu, maze bimubuza kubona muri Yesu Umunyanazareti, Mesiya yavuzwe n'abavugishwa n'Imana.

Ubwo Sauli yemeye ivyemezo vya Mpwemu Yera, yabonye amakosa y'ubuzima bwiwe, kandi yemera ivyo ivyagezwe vy'Imana bitegeka. Uwo yamye ari Umufarisayo yishira hejuru, yizeye ko atsindanishirizwa n'ibikorwa vyiwe vyiza, ubu noneho yunamye imbere y'Imana yicishije bugufi kandi yiyoroheje nk'umwana muto, yatura ko atabereye, kandi yiyambaza ibikorwa vy'Umukiza yabambwe kandi akazuka. Sauh yifuza kugira imigenderanire na

Data n'Umwana; kandi ku bwo kwifuza kubabarirwa no kwemerwa, yatakamvye ashimitse imbere y'intebe y'imbabazi. Amasengesho y'uwo Mufarisayo yihanye nti yabaye impfagusa. Umutima wiwe n'ivyiyumviro vyahinduwe n'ubuntu bw'Imana; n'inkomezi ziwe zigiriranira ubumwe n'imigambi idashira y'Imana. Kristo n'ubugororotsi bwiwe vyamurutiye isi yose.

Uguhinduka kwa Sauh ni icemezo ntahinyuzwa c'ububasha butangaje bwa Mpwemu Yera bwemeza umuntu icaha. Yari yizeye vy'ukuri ko Yesu Umunyanazareti yari yarirengagije ivyagezwe vy'Imana, maze yigisha abigishwa biwe ko bitagira ikimazi. Ariko amaze guhinduka, Sauli yatahuye ko Yesu ari wa wundi yari yaje mw'isi afise intumbero yo kwemeza ivyagezwe vya Se. Yemeye ko Yesu ari we yashinze imihango yose y'igitutu, ko Kristo yari yashikije amajambo yavuzwe n'abavugishwa n'Imana yo mw'Isezerano rya Kera yerekeye Umucunguzi wa Isirayeh. Mu nkuru z'ihinduka rya Sauh, turonkamwo ingingo ngenderwako, dutegerezwa kwamana mu bwenge. Sauh yazanywe imbere ya Kristo. Uwo ni we Kristo yari yateguriye igikorwa gihambaye, uwari agenewe kuba «igikoresho yitoranirije». Ariko Umwami ntiyashotse amubwira igikorwa yari yamushinze. Yamuhagaritse ari mu nzira kandi amwemeza icaha; ariko igihe Sauh yabaza ngo «Ushaka nkore iki?» Umukiza yeretse ishengero ryiwe uwo Muyuda ariko arashakashaka, ngo muri ryo amenye ico Imana imushakako.

[63] Wa muco wamurikira umwiza wa Sauli cari igikorwa c'Umwami; ariko hari hakiriho kandi n'igikorwa abigishwa biwe bari bajejwe kumukorera. Kristo yari yakoze igikorwa co guhishura no kwemeza; none ubu naho uwo muntu yihanye yategerezwa kwigishwa n'abo Imana yashize iruhande ngo bigishe ukuri kwayo. Igihe Sauli yakomeje kuba mu nzu ya Yuda ari wenyene, abandanya gusenga no gutakamba, Umwami yiyereka «umwigishwa w'i Damasiko yitwa Ananiya,» amubwira ko Sauli w'i Taruso yariko arasenga, kandi ko akeneye ubufasha. «Va hasi, uje mu nzira yitwa Iyigororotse,» iyo ntumwa yo mw'ijuru yavuze ngo «ubarizeyo mu rugo kwa Yuda umugabo yitwa Sauh w'i Taruso: kuko ariko arasenga, kandi yeretswe abona umuntu yitwa Ananiya yinjira aho ari, amurambikako ibiganza, kugira ngo ahumuke.»

Ananiya vyaramugoye kwemera amajambo y'umumarayika; kuko inkuru za Sauh ahama abera i Yerusalemu zari zarakwiragiye

kure kandi hose. Yiyumvira kumwishura ati, «Mwarni, uwo mugabo numvise benshi bavuga ivyiwe, vy'inabi nyishi yagiriye abera bawe i Yerusalemu: kandi n'ino ahafise ububasha abuhawe n'abaherezi bakuru, bwo kuboha abambaza izina ryawe bose.» Ariko itegeko ryabaye ntabanduka: «Pfa kugenda, kuko uwo muntu ari ikintu nitoranirije, ngo ajane izina ryanje imbere y'amahanga, n'abami n'Abisirayeh.»Ananiya yumvira uwo mumarayika, arondeza uwo muntu yahoze ahiga abantu bose bizeye izina rya Yesu; nuko arambika ibiganza ku mutwe w'uwo muntu yihanye ababaye, ati «Sauli, mwene Data, Umwami arantumye, niwe Yesu yakubonekeye mu nzira wazananye, ngo uhumuke, wuzuzwe Mpwemu Yera.» «Uwo mwanya nyene ibisa n'ibikaragashi bimuva ku maso, arahumuka, ava hasi, arabatizwa.» Muri ubwo buryo Yesu yemeje ububasha bw'ishengero ryiwe ritunganijwe, maze arongora Sauli ku bikoresho vyiwe yashinze kw'isi. Kristo yari afise noneho ishengero rimuserukira kw'isi, kandi ni ryo ryahawe igikorwa co kurongora mu nzira y'ubugingo umunyavyaha yihanye. Benshi biyumvira ko bategekwa na Kristo gusa ku vyerekeye umuco n'ubuzima bwabo, batitayeho ishengero ryayo yatunganije kw'isi. Yesu ni incuti y'abanyavyaha, kandi umutima wiwe ubabazwa n'ivyago bibashikira. Afise ubushobozi bwose, mw'ijuru no kw'isi; ariko arubaha ibikoresho yashize i ruhande ku bwo kumurikira no gukiza abantu; arongora abanyavyaha kw'ishengero, iryo yagize umuringoti w'umuco kw'isi.

Igihe yari ari mu buhumyi bw'amakosa n'ivyiyumviro bigoramye, Sauh yahishuriwe Kristo, uwo yariko arahiga, yarongowe kw'ishengero, ryo muco umurikira isi. Muri iki kiringo rero, Ananiya aserukira Kristo, kandi aserukira abakozi ba Kristo kw'isi, abatoranijwe ngo bakore mu kiringo ciwe. Mu kiringo ca Kristo, Ananiya akora ku maso ya Sauli, ngo ashobore kubona. Mu kiringo ca Kristo, amurambikako ibiganza, kandi, ubwo asenga mw'izina [64] rya Kristo, Sauli aronka Mpwemu Yera. Vyose bikorwa mw'izina n'ububasha bwa Kristo. Kristo ni isoko; ishengero na ryo ni umuringoti ujana ayo mazi.

## Ikigabane ca 13: Imisi Yo Kwitegura

*Iki Kigabane Gishimikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 9:19-30.*

Amaze kubatizwa, Paulo yarangije ukwisonzesha kwiwe, maze agumana imisi n'abigishwa b'i Damasiko. Aca aherako avuga mu masinagogi ivya Yesu, yuko ari Umwana w'Imana . Avuga n'ubushizi bw'amanga ko Yesu Umunyanazareti ari umwe Mesiya bari bararindiriye, «yapfiriye ivyaha vyacu, nk'uko Ivyanditswe bivuga;... agahambwa, ... kandi akazuka ku musi ugira gatatu,» maze abonana na bamwe cumi na babiri, n'abandi. Paulo arongera avuga ati, «maze hanyuma ya bose,» nanje aranyiyereka, meze nk'inda yakorotse.» 1 Ab'i Korinto 15:3,4,8. Ivyiyumviro vyiwe bivuye mu majambo y'abavugishwa n'Imana yari atomoye neza, kandi ibikorwa vyiwe vyagaragaza ko akoreshwa n'ubushobozi bw'Imana, ku buryo Abayuda baburaniwe kandi bakananirwa kumwishura. Inkuru yuko Paulo yahindutse yatangaje cane Abayuda. Uwari yagiye i Damasiko «afise ububasha kandi arungitswe n'abaherezi bakuru» gufata n'uguhiga abizera, ubu noneho ariko yigisha ubutumwa bwiza bw'Umukiza yabambwe kandi akazuka, akomeza ibiganza vy'abari bamaze kuba abigishwa, azana na ntaryo abahindutse basha mu kwizera yahora arwanya yivuye inyuma. Paulo yahoze azwi ko arwanira idini y'Abayuda kandi ahama abigishwa ba Yesu atiziganije. Inshigwarimenetse, yidegemvya, idacika intege, ingabire ziwe n'amashure yiwe vyari kumushoboza gukora hafi igikorwa ico ari co cose. Yashobora guharira afise ivyiyumviro birashe, kandi imvugo yiwe y'agahemo yashobora kubuza amahoro uwumurwanya. Maze noneho Abayuda babona uyu musore afise kazoza kadasanzwe yifatanije n'abo yahora ahama, kandi yigisha adatinya mw'izina rya Yesu.

Umukuru w'ingabo aguye ku rugamba ni uruhombo ku ngabo ziwe, ariko urupfu rwiwe nta nkomezi zindi rwongereza ku kugwanya inkomezi z'umwansi. Ariko iyo umuntu kizigenza yifatanije n'umwansi, si ibikorwa vyiwe gusa bagenzi biwe baba batakaje,

ahubwo abo yiyunze nabo baba bungutse cane. Sauh w'i Taruso, igihe yariko agana i Damasiko, umwami yari kumwica bitagoranye, kandi ubushobozi bw'abahiga abizera bwari kuba bugabanutse. Ariko Imana mu nteguro yayo, ntiyaziganije gusa ubuzima bwa Sauli, ahubwo yaramuhinduye, muri ubwo buryo avana umuhizi ku ruhande rw'umwansi amwimurira ku ruhande rwa Kristo. Umuntu w'imvuzi kandi azi gushishoza, Paulo yari afise ibikenewe muri iryo shengero rya mbere.

Ubwo Paulo yigisha i Damasiko, abamwumva bose baratan- [65]
gara bavuga bati «Mbega uyu si we yatikije abambaza iryo zina i Yerusalemu, kandi nico cari kimuzanye n'ino, kugira ngo abashire abaherezi bakuru bari mu ngoyi?» Paulo yavuze ko ihinduka ry'ukwizera kwiwe ritasunitswe n'igihababu canke ubuhizi bwo kurwanira idini, ahubwo ko ryazanywe n'ibintu yabonye bigaragara. Mu kwigisha ubutumwa bwiza, yagerageza kwerekana ivyavuzwe n'abavugishwa n'Imana vyerekeye umuzo wa mbere wa Kristo. Yarangiza Yerekana ko izi mburi zasohoye ijambo kw'ijambo muri Yesu Umunyanazareti. Ishimikiro ry'ukwizera kwiwe yari ijambo ry'abavugishwa n'Imana.

Paulo yabandanije yinginga abamwumviriza ngo «bihane, bahindukirire Imana, bakore ibikorwa bikwiranye n'ukwizera» (Ivyakozwe n'Intumwa 26:20), «akomeza kugira ubushobozi, kandi atsinda Abayuda baba i Damasiko, abereka ko uwo koko ari we Kristo.» Ariko benshi bikomantaza imitima, banka kwakira ubutumwa bwiwe, kandi bidatevye kwa gutangarira uguhinduka kwiwe guhinduka urwanko runuka nka rwa rundi bari bafitiye Yesu. Ukumurwanya kwarakomeye cane gushika aho Paulo adashobora kubandanya ibikorwa vyiwe i Damasiko. Ubutumwa buvuye mw'ijuru bumusaba kuba aravuye i Damasiko akanya, niko «kuja muri Arabiya» (Ab'i Galatiya 1:17), aho yaronkeye ubuhungiro. Aha, mu bwiherero bw'ubugaragwa, niho Paulo yari afise akaryo gahagije ko kwiga no kwiyumvira. Yasubiyemwo yitonze kahise kiwe, kandi akomeza ukwihana kwiwe. Yarondeye Imana n'umutima wiwe wose, ntiyahumeka gushika aho amenya adakekeranya ko ukwihana kwiwe kwemewe, kandi ko icaha ciwe cahariwe. Yarondera icemezo ko Kristo azobana nawe mu gikorwa ciwe. Yiyambuye ivyiyumviro vyiwe bigoramye n'imigenzo yari yubakiyeko ubuzima bwiwe, yakira inyigisho kw'isoko y'ukuri. Kristo yanywanye

nawe kandi amukomeza mu kwizera, amusukako ubutunzi bwinshi bw'ubwenge n'ubuntu.

Igihe ubwenge bw'umuntu bunywanishijwe n'ubw'Imana, uwufise imbibe akanywanishwa uwutagira imbibe, ico bikora ku mubiri, ku bwenge no ku mutima birengeye ivyiyumviro. Mu bumwe nk'ubwo hari ubwenge bwo hejuru cane. N'uburyo Imana ubwayo ikoresha mu gukuza umuntu. «Enda rero ni wiyuzuze nayo» (Yobu 22:21), nibwo butumwa bwiwe ku bantu. Ibango Paulo yaremetswe igihe yavugana na Ananiya, ryagumye rikomeza kuremera umutima wiwe. Igihe rya jambo ryari rimaze kuvugwa ngo «Sauli, mwene Data, humuka,» Paulo akabona ubwa mbere uwo muntu w'Imana, Ananiya asunitswe na Mpwemu Yera yamubwiye ati «Imana ya ba sogokuruza yagutoranije kumenya ivyo igomba, no kubona wa Mugororotsi, no kwumva ijwi riva mu kanwa kiwe: kuko uzombera
[66] icabona ku bantu bose ku vyo wabonye kandi wumvise. None ikigutevya ni iki ? Va hasi, ubatizwe, wiyuhagire ivyaha vyawe, wambaze izina ry'Umwami.» Ivyakozwe n'Intumwa 26:13-16.

Aya majambo yari ahuye n'amajambo ya Yesu ubwiwe, igihe yahagarika Sauh mu nzira aja i Damasiko, avuga ati «Igitumye ndakwiyereka ni ukugira ngo ndagutoranye nkugire umukozi wanje n'icabona co gushingira intahe ivyo umbonanye, n'ivyo

nzokwiyerekeramwo; ndagukize abo muri ubu bwoko bo n'abanyamahanga, ni bo ngutumyeko, kubahumura, amaso, kugira ngo bahindukire bave mu mwiza baje mu muco, bave no ku bubasha bwa Satani baje ku Mana, bateko baharirwe ivyaha vyabo, baraganwe n'abejejwe n'ukunyizera.» Ivyakozwe n'Intumwa 26:16-18. Ubwo yiyumvira ibi bintu mu mutima wiwe, Paulo niko yakomeje gutahura umuhamagaro wiwe «wo kuba Intumwa ya Yesu Kristo nk'uko Imana yagomvye.» 1 Ab'i Korinto 1:1. Umuhamagaro wiwe nti wari wavuye «ku bantu, canke ku muntu, ariko kuri Yesu Kristo, n'Imana Data.» Ab'i Galatiya 1:1. Uburemere bw'igikorwa yahawe bwatumye yiga cane Ivyanditswe Vyera, kugira ngo avuge ubutumwa «atavugishije ubwenge bw'amajambo, kugira ngo umusaraba ntucike ubusa,» ariko «biserukemwo Mpwemu Yera n'ubushobozi,» kugira ngo ukwizera kw'abumva bose «ntiguhagarare mu bwenge bw'abantu, ariko guhagarare mu bushobozi bw'Imana.» 1 Ab'i Korinto 1:17; 2:4,5.

Ubwo Paulo yasesangura mu Vyanditswe, yamenye ko uhereye kera «abo ubwenge bw'abantu bahamagawe atari benshi, abakomeye bahamagawe atari benshi, abafasoni bahamagawe atari benshi: ariko Imana yatoranije ibipfu vyo mw'isi, ngo imaramaze abanyabwenge: kandi yatoranije ibinyantege nke vyo mw'isi ngo imaramaze ibikomeye, kandi n'ivyoroheje vyo mw'isi, n'ibikengerwa, mbere n'ibitariho, Imana yarabitoranije ngo ititure ibiriho: kugira ngo ntihagire umuntu yirata imbere y'Imana.» 1 Ab'i Korinto 1:26-29. Maze, abonye ubwenge bw'isi abugerereranije n'umuco w'umusaraba, Paulo «yafashe ingingo yo kutagira ico amenya,... atari Yesu Kristo, we yabambwe.» 1 Ab'i Korinto 2:2. Mu gikorwa ciwe, no mu misi yakurikiye, Paulo ntiyigeze yibagira isoko y'ubwenge bwiwe n'inkomezi ziwe. Imyaka myinshi inyuma y'aho, mwumvirize namwe ingene avuga ati: «Ku bwanje, kubaho ni Kristo.» Ab'i Filipi 1:21. Kandi arongera ati «Eka mbere n'ibintu vyose ndavyiyumvira ko ari ubuhombe, ku bw'ikibirengeye, nico kumenya Kristo Yesu Umwami wanje: ku bw'uwo nahomvye ibintu vyose,...kugira ngo ndonke Kristo, kandi mboneke ko ndi muri We, ntafise ukwanje kugororoka, kumwe kuva ku vyagezwe, ariko mfise kumwe kuzanwa no kwizera Kristo, ni kwo kugororoka kuva ku Mana, guhabwa uwizeye: ngo ndamumenye, menye n'ubushobozi bw'ukuzuka kwiwe, no gufatanya nawe imibabaro yiwe,» Ab' i Filipi 3:8-lo.

Avuye muri Arabiya, Paulo «yasubiye i Damasiko» (ab'i [67]
Galatiya 1:17), maze «avuga ubutumwa bwiza ashize amanga... mw'izina rya Yesu.» Bananiwe guhangarana n'ubwenge bw'amajambo yiwe, «Abayuda baja inama yo kumwica.» amarembo y'igisagara yari arinzwe cane ijoro n'umutaga ku buryo bitashoboka ko bamuhungisha. Ibi bihe bigoye vyatumye abigishwa barondera cane Imana, maze vyabaye kera «bamujana mw'ijoro, bamucisha mu ruzitiro rw'amabuye, bamwururukirije mu giseke.» Amaze guhunga ava i Damasiko, Paulo yagiye i Yerusalemu, inyuma y'imyaka itatu ahindutse. Intumbero nyamukuru yamujanye yo, nk'uko abivuga mu nyuma, yari «kubona Petero.» Ab'i Galatiya 1:18. Ashitse muri ca Gisagara yari asanzwe azwi neza nka Sauli «uwuhiga Abakristo,» agerageza kwifatanya n'abigishwa: bose baramutinya, ntibemera ko ari umwigishwa.» Vyari bigoye kuri bo kwemera ko Umufarisayo bukovongo nka we, kandi yakoze vyinshi ngo arandure ishengero, yoshoboye kuba umwigishwa wa Yesu w'ukuri. «Ariko Barunaba,

aramwakira, amushira intumwa, aziganira ingene yabonye Umwami Yesu, mu nzira, n'ingene yavuganye nawe, n'ingene yavuze ashize amanga mw'izina rya Yesu i Damasiko.»

Bamaze kuvyumva, abigishwa bamwakira nk'umwe wo muri bo. Bidatevye, baronse ivyemezo bihagije vyerekana ukuri kw'ubukristo bwiwe. Uwo muntu yahindutse intumwa ku banyamahanga yari ashitse mu gisagara kirimwo abahoze bafatanije nawe, kandi yifuza cane kwereka abo barongozi b'Abayuda ivyo abavugishwa n'Imana bavuze kuri Mesiya, vyari vyasohojwe n'ukuza kwa mbere kw'Umukiza. Paulo yibajije ko abo bigisha muri Isirayeh bari bazinanye neza, bari abanyakuri n'abizigirwa nk'uko nawe yari. Ariko yari yihenze ku vyerekeye umutima wa bene se b'Abayuda, maze icizere yari afise ko bashobora guhinduka bidatevye, gihinduka agahinda n'umubabaro. Nubwo «yavuze ashize amanga mw'izina ry'Umwami Yesu, agaharira n'Abagiriki,» abo ku ruhande rw'Abayuda baranse kwizera, ahubwo «baja kugira inama yo kumwica.» Agahinda kamwuzuye umutima. Yari yiteguye guheba ubugingo bwiwe kugira ashobore kuzana bamwe kumenya ukuri. Yiyumvirana isoni uruhara rukomeye yagize mu rupfu rwa Stefano, maze noneho, kugira ngo ahanagure ikimenyetso cari ku muntu yagirije ibinyoma umwere, ashaka kurwanira ukuri kwatumye Stefano atanga ubuzima bwiwe. Paulo, aremerewe n'umutwaro w'abo banse kwizera, ari mu rusengero asenga, nk'uko abishingira intahe mu nyuma, amera nk'uwurota; intumwa yo mw'ijuru iramwiyereka ihagarara imbere yiwe, maze ivuga ngo, «tebuka, uve i Yerusalemu vuba: kuko batazokwemera ivyo unshingira intahe.» Ivyakozwe n'Intumwa 22:18.

Paulo vyabaye ngombwa ko aguma i Yerusalemu, aho yashobora guhura n'abamurwanya. Kuri we vyasa nk'aho guhunga
[68] vyari kugaragara ko ari ikijora, namba kuguma aho yari gushobora kugondoza bamwe mu Bayuda b'intagondwa bakakira ubutumwa bwiza, naho vyari kumusaba kuhasiga ubuzima. Niko kwishura ati, «Mwami, nabo ubwabo barazi yuko nashira abakwizeye mw'ibohero, nkabatonagurira mu masinagogi yose; kandi hamwe amaraso y'uwagushingira intahe Stefano yava, nanje ni ho nari mpagaze, ndabishimye, nsanze impuzu z'abamwica.» Ariko nti vyari mu mugambi w'Imana ngo umusuku wayo apfe ata mpamvu; maze ya ntumwa yo mw'ijuru isubiza iti, «Genda: kuko nzogutuma

kure ku banyamahanga.» Ivyakozwe n'Intumwa 22:19-21. Bamaze kumenya ivyo yeretswe, abavukanyi bihutira guhungisha Paulo, ava i Yerusalemu mw'ijoro, batinya ko bomwica. Bamumanukana i Kayisariya, maze bamurungika i Taruso.» Kugenda kwa Paulo kwatumye ubushangashirwe bw'Abayuda buhagarara mu gihe gito, n'ishengero rigira agahengwe, katumye benshi biyongera ku gitigiri c'abizera.

## Ikigabane ca 14: Umuntu Arondera Ukuri

*Iki Kigabane gishimikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 9:32 ; 11:18.*

Mu gihe yariko aravuga ubutumwa bwiza, intumwa Petero yagendeye abizera i Luda. Akiza Ayineya, yari amaze imyaka umunani avundiye mu buriri kuko yari yaramugaye.Iyo ntumwa ivuga iti, «Ayineya, Yesu Kristo aragukijije.» «Aca arahaguruka ako kanya. Ababa i Luda n'i Saroni bamubonye bahindukirira Umwami Yesu.» I Yopa, yari i ruhande ya Luda, hari umugore yitwa Doruka, ibikorwa vyiwe vyiza vyari vyatumye akundwa cane. Yari umwigishwa wa Yesu w'intungane, kandi ubuzima bwiwe bwarangwa n'ibikorwa vy'ubugwaneza. Yari azi umuntu akeneye agahuzu, n'uwari akeneye kwitabwaho, kandi yafasha aboro n'abababaye n'umutima ubikunze. Intoke ziwe zari zikerebutse kurusha ururimi rwiwe. «Muri iyo misi ararwara, arapfa.» Ishengero i Yopa ribonye ko ryabuze, kandi ryumvise ko Petero yari i Luda, abizera bamutumako intumwa, «bamwinginga ko atoteba kubashikira. Nuko Petero ava hasi ajana nabo. Ashitseyo, bamujana muri ya nzu yo hejuru: abapfakazi bose bahagarara i ruhande yiwe barira, berekana amapfundo n'imitamana Doruka yapfunditse akiri muri bo. «Ntibitangaje kubona barira, wihweje ingene Doruka yabayeho yitangira abandi.

Iyo ntumwa igira ikigumbagumba n'impuhwe, ibonye akababaro kabo. Nuko ataramura abo bavandimwe ngo bave muri ico cumba, arapfukama, maze asenga Imana yinginga ngo igarukane Doruka abe muzima. Ahindukirira uwo muvyimba, ati «Tabita, vyuka. Arakanura: maze abonye Petero aravyuka aricara.» Doruka yari yakoreye
[69] vyinshi ishengero, kandi Imana yashimye kumugarukana muri iyisi y'umwansi, ngo ubukerebutsi n'inkomezi vyiwe bibandanye kubera abandi umugisha, kandi ku bwo kwigaragaza kw'ubushobozi bwayo igikorwa ca Kristo gihabwe inkomezi. Igihe Petero yari akiri i Yopa, niho yahamagarwa n'Imana ngo ashire ubutumwa bwiza Koruneliyo, i Kayisariya. Korunehyo yari intwazangabo y'abasoda ijana. Yari umimtu atunze kandi wo mu nda y'abami, kandi igikorwa

yari ajejwe cari ico umuntu yizigirwa kandi yubahwa. Yari yavutse ari umupagani, yiga mu bapagani, kandi arererwa mu bapagani. Kubera yabanye n'Abayuda, yaramenye Imana, kandi yarayisenga n'umutima utagira ubudyadya, yerekana ukuri kw'ukwizera kwiwe mu gufasha aboro. Yari azwi hose ku vyiza yakora, kandi ubuzima bwiwe bugororotse bwatumye avugwa neza n'Abayuda, mbere n'abanyamahanga. Ubuzima bwiwe bwari umugisha ku bantu bose bahwana nawe. Ivyanditswe Vyera bivuga ko yari «umuntu yubaha Imana n'abo mu nzu yiwe bose, yagirira abantu ubuntu bwinshi, agasenga Imana ubudasiba.» Kuko yizera Imana nk'Umuremyi w'ijuru n'isi, Korunehyo yarayubaha, akemera ububasha bwayo kandi akayisaba inama mu vyo akora vyose. Yizera Yehova mu rugo rwiwe no mu bikorwa yashinzwe n'igihugu. Yari yarubatse igicaniro mu nzu yiwe, kuko atahirahira ngo agire umugambi uwo ari wo wose canke kurangura ibikorwa ajejwe adasavye ubufasha bwTmana.

Naho Koruneliyo yemera Ivyanditswe n'abavugishwa n'Imana kandi yari arindiriye Mesiya azoza, nti yari azi ubutumwa bwiza nk'uko buhishuwe mu buzima n'urupfu vya Kristo. Nti yari umwe mu bagize ishengero ry'Abayuda, kandi abigisha b'ivyanditswe bamufata nk'umupagani n'uwuhumanye. Ariko wa Murinzi Yera yabwira Aburahamu ati, «Ndamuzi,» na Korunehyo yari amuzi, niko kumurungikira intumwa ivuye mw'ijuru.

Uwo mumarayika yiyeretse Korunehyo ariko arasenga. Iyo ntwazangabo y'abasoda ijana yumvise ihamagawe mw'izina, yagize ubwoba, ariko imenya ko iyo ntumwa yari yavuye ku Mana, niko kuvuga iti, «Ni iki ga Mwami?» Wa mumarayika yishura ati, «Gusenga kwawe n'ubuntu bwawe vyaduze biba icibutso imbere y'Imana. None rero tuma abantu i Yopa, utumeko umuntu yitwa Simoni, ariwe Petero; asembereye kwa Simoni umukanyi w'insato, urugo rwiwe ruri i ruhande y'ikiyaga.» Uburyo outomoye yamurongoyemwo, akavuga mbere n'igikorwa uwo muntv yabana na Petero akora, vyerekana ko Ijuru rizi ido n'ido ubuzima n'igikorwa c'umuntu wese aho ageze hose mu rugendo rw'ubuzima. Imana irazi neza ubuzima n'igikorwa c'umukozi wo hasi y'abandi, nk'uko izi uwicaye ku ntebe y'ubwami. «Rungika abantu i Yopa, maze utumeko umuntu yitwa Simoni.» Aha Imana yerekanye ko yitayeho igikorwa c'ubutumwa bwiza, n'ishengero ryayo rifise inzego

[70] z'uburongozi. Uwo mu marayika ntiyari yahawe igikorwa co kubwira Koruneliyo inkuru y'umusaraba. Umuntu ashobora kugira intege nke agashikirwa n'ibigeragezo, nka Koruneliyo, niwe yategerezwa kumubwira Umukiza yabambwe kandi akazuka.

Nk'ivyariho vyayo mu bantu, Imana ntiyatoye abamarayika batigeze bakora icaha, ahubwo yatoye abantu, bafise ivyifuzo nk'ivyo abo bantu bagendereye gukiza. Kristo yambaye umubiri w'umuntu ngo akize umuntu. Umukiza, Imana-Muntu, yari akenewe ngo azanire isi agakiza. Kandi abagabo n'abagore nibo bahawe igikorwa cera co gutangaza «itunga rya Kristo ritagira imbibe.» Abanyefeso 3:8. Uhoraho mu bwenge bwiwe azana abantu barondera ukuri akabashikana ku bantu bazi ukuri. Umugambi w'ijuru ni uko abaronse umuco bawushira abari mu mwiza. Abantu bavoma ububasha kw'isoko nkuru y'ubwenge, bagizwe ibikoresho ubutumwa bwiza bucamwo ngo buhindure ubwenge n'umutima.

Koruneliyo yumviye ivyo yeretswe. Wa mumarayika amaze kugenda, ya ntwazangabo y'abasoda ijana «yahamagaye babiri mu basuku biwe, n'umusoda yubaha Imana wo mu bamugendanira, ahejeje kubiganira vyose, abatuma i Yopa.» Wa mumarayika ahejeje kuvugana na Korunehyo, yagiye kwa Petero, i Yopa. Ico gihe Petero yariko arasenga ari hejuru ku nzu, kandi dusoma ngo «yumva ashonje, agomba kurya: bakibirondera, amera nk'uwurota.» Petero nti yari ashonje ivyokurya vy'umubiri gusa. Ubwo yari hejuru ku nzu, yitegereje igisagara c'i Yopa n'uturere tuhakikuje twaho bishonje agakiza. Yifuza cane kubashikiriza inkuru z'imibabaro n'urupfu vya Kristo biri mu vyavuzwe n'abavugishwa n'Imana. Petero abona «ijuru ryugurutse, maze hamanuka ikintu kimeze nk'uruhuzu runiniya, rufashwe ku mitwe ine, kiza hasi, harimwo ubwoko bwose bw'ibigenza amaguru ane, n'ibikwega inda hasi vyo kw'isi, n'ibiguruka vyo mu kirere. Haza ijwi, riramubarira, riti, Va hasi, Petero, ubage, urye. Petero ati Oyaye, Mwami, kuko ntigeze ndya ikizira canke igihumanya. Iryo jwi risubira kuza ubugira kabiri, riramubarira, riti ivyo Imana yahumanuye, reka kuvyita ibizira. Biba bityo gatatu, ico kintu gica gisubizwa mw'ijuru.» Ivyakozwe n'Intumwa 10:11-16.

Ivyo Petero yeretswe vyari bigendereye gukosora no kumwigisha. Vyamuhishuriye intumbero y'Imana-ko biciye mu rupfu rwa Kristo abanyamahanga bategerezwa kugirwa abara-

ganwa n'Abayuda imihezagiro y'agakiza. Gushika ico gihe, nta n'umwe mu bigishwa yari bwigishe ubutumwa bwiza abanyamahanga. Mu bwenge bwabo, igihome cabatandukanya casenyuwe n'urupfu rwa Kristo, cari kikiriho, kandi ibikorwa vyabo vyagarukira ku bayuda, kuko baraba abanyamahanga nk'abakumiriwe ku mihezagiro y'ubutumwa bwiza. Uhoraho yashaka kwigisha Petero ko umugambi w'Imana ari uwo gukiza amahanga yose.

Benshi mu banyamahanga bari bumvirije neza insiguro ya Pe- [71]
tero n'izindi ntumwa, kandi benshi mu Bayuda b'Abagiriki bari bizeye Kristo, ariko ihinduka rya Koruneliyo ryabaye irya mbere mu banyamahanga. Igihe cari kigeze kw'ishengero rya Kristo ngo igikorwa cinjire mu kiringo gisha. Urugi Abayuda benshi bahindukiriye Kristo bari barugaye ngo abanyamahanga ntibinjire, rwari rwugurutse. Kandi abapagani bakiriye ubutumwa bwiza bategerezwa kurabwa nk'abangana n'abigishwa bakomotse mu Bayuda, batarinze gukurikiza umugenzo wo gukebwa. Raba ubwitonzi Umwami yakoranye ngo arandure ivyiyumviro bigoramye Ku vyerekeye abanyamahanga vyari vyinjijwe muri Petero n'indero yiwe y'Ikiyuda! Ku vyo yeretswe vy'igihuzu n'ibiri muri co, yashaka ko iyo ntumwa yitandukanya n'ibi vyiyumviro bigoramye, no kwigisha ukuri guhambaye ko mw'ijuru ata gutandukanya abantu; ko Umuyuda n'Umunyamahanga bose bafise agaciro kangana mu maso y'Imana; ko muri Kristo abapagani bashobora kugirwa abasangira n'abandi imihezagiro n'imigisha y'ubutumwa bwiza.

Igihe Petero yariko yiyumvira ubusobanuro bw'ivyo abonye, ba bagabo barungitswe bavuye i Yopa baba barashitse kandi bahagarara kw'irembo y'aho yari asembereye. Mpwemu amubwira ati, «Hari abantu batatu bariko barakurondera. None va hasi, wururuke ujane na bo ataco ukekeranya: kuko ari jewe ndabatumye.» Kuri Petero iri tegeko ryamubereye nk'ikigeragezo, kandi yagenda afise amakenga mu kugira intambwe akora ico ategetswe; ariko nti yubahutse kugambarara. «Arururuka, asanga abo bantu aho bari, arababarira, ati Ni jewe uwo murondera: mbega mugenzwa n'iki? Bamubwira ko bagenzwa n'ikintu kimwe gusa, bati «Korunehyo, intwazangabo y'abasoda ijana, umuntu agororoka yubaha Imana, ashimwa n'ubwoko bwose bw'Abayuda, yabariwe n'umumarayika yera kugutumako, ngo uze iwe, yumve amajambo yawe.»

Iyo ntumwa ku bwo kwubaha ibivuye ku Mana, asezerana kujana nabo. Bukeye ava hasi aja i Kayisariya, aherekejwe na bene Data batandatu. Aba bategerezwa kuba ivyabona ku vyo azovuga vyose canke azokora mu kiringo azoba ariko aragendera abanyamahanga, kuko Petero yari azi ko azobazwa impamvu yateye kubiri n' inyigisho z'Abayuda. Ubwo Petero yinjira mu nzu y'umunyamahanga, Koruneliyo nti yamuramukije nk'umushitsi asanzwe, ariko yamuhaye icubahiro co mw'ijuru nk'intumwa irungitswe n'Imana. Wari umugenzo wo mu buseruko kwunamira umuganwa canke abandi banyacubahiro, n'abana kwunamira abavyeyi babo; ariko Kornehyo we yararengejeko kuko abonye intumwa irungitswe n'Imana kumwigisha, yikubita ku birenge vy'iyo ntumwa aramupfukamira.
[72] Petero agwa mu gahundwe, akura hasi iyo ntwazangabbo y'abasoda ijana, avuga ati, «Va hasi; nanje ndi umuntu nkawe.»

Intumwa za Koruneliyo igihe zari zatanguye urugendo, iyo ntwazangabo y'abasoda «yari yaciye ikoranya incuti n'abagenzi,» ngo nabo nyene baze kwumviriza inyigisho z'ubutumwa bwiza. Petero ashitse, asanga abantu benshi bakoranye banyotewe kwumva amajambo yiwe. Abo bantu bakoranye, Petero yabanje kubabwira ivy'umugenzo w'Abayuda, ko bitemerewe n'amategeko kwivanga n'abanyamahanga, ko kubikora bihumanya. Avuga ati, «Murazi yuko kizira ko umuntu w'Umuyuda yifatanya n'uwo ubundi bwoko, canke ko amugendera: ariko jeho Imana yanyeretse yuko ntogira umuntu nita ikizira canke igihumanya. Nico catumye nza ntarinze guhakana, ntumweko. None rero ndabaza ico mwantumiyeko ico ari co?» Koruneliyo aherako amwiganira ivyamushikiye vyose, n'amajambo y'umumarayika, arangiza avuga ati, «Uwo mwanya nca ndagutumako rero nawe urayobotse ko uje. None rero, twese turi hano imbere y'Imana, kwumva ivyo Umwami Imana yakugeze kutubwira vyose.» Petero yavuze ati, «Ni ukuri niho nkimenya ko Imana itarobanura abantu ku butoni, ariko mu mahanga yose uwuyubaha, agakora ivyo ukugororoka, iramwemera.»

Iyo ntumwa iherako yigisha iryo koraniro ry'abantu bateze amatwi cane ivya Kristo-Ubuzima bwiwe. Ibitangaza vyiwe, ingene bamuguze, n'ingene bamubamvye, izuka ryiwe n'iduzwa ryiwe mw'ijuru, n'igikorwa ciwe mw'ijuru nk'uwuserukira abantu kandi akababuranira. Igihe Petero yabereka Yesu nk'ivyizigiro vy'abanyavyaha, we ubwiwe yatahuye neza ubusobanuro bw'ivyo

yari yeretswe, maze umutima wiwe unezerwa n'ugutahura ukuri yariko arigisha. Amajambo ya Petero buno nyene ahagarikwa n'ukumanuka kwa Mpwemu Yera. «Petero akivuga ayo majambo Mpwemu Yera aramanuka, aja ku bariko barumva iryo jambo bose. Abizeye bo mu bakebwe barumirwa, abazananye na Petero uko bangana, kuko n'abanyamahanga na bo basutsweko ingabire, ari yo Mpwemu Yera. Kuko bumvise bavuga izindi ndimi, bahimbaza Imana.

«Maze Petero arababaza, ati mbega hari uwoshobora kwima amazi abahawe Mpwemu Yera nkatwe, ngo babatizwe? Avuga ko babatizwa mw'izina rya Yesu Kristo.»Uku niko ubutumwa bwiza bwahawe abahora ari abariyamahanga n'abakure, bubagira abavukana n'abera, n'abo mu nzu y'Ima ia. Guhinduka kwa Koruneliyo n'abo mu nzu yiwe bose wari umushuzo w'umwimbu uzosarugwa. Uhereye kuri iyo nzu, igikorwa c'ubuntu caragutse gjkwira muri ico gisagara c'abapagani. Uyu musi Imana iriko irarondera imitima mu bantu bo hejuru no mu boroheje. Hari benshi bameze nka Korunehyo, abagabo Umwami yifuza gushira mu gikorwa ciwe mw'isi. Bifuza kuba mu bantu b'Imana, ariko imigozi ibaboheye kw'isi iragumye cane. Hakenewe ko abantu b'inshigwarimenetse bafata ingingo ku bwa Kristo. Hategerezwa [73]
gukorwa utwigoro tudasanzwe ku bw'iyo mitima, iri mu kaga gakomeye, kubera amabanga bajejwe n'abo bagendana.

Imana irahamagara abakozi b'inkomezi, bicisha bugufi, bazotwara ubutmwa bwiza ku bantu b'abanyacubahiro. Hari ibitangaza vy'ukuri vyokorwa maze abantu bagahinduka,-ibitangaza bitabonwa ubu. Abantu bahambaye cane b'iyi si ntibashobora kunanira Imana ikora ibihambaye. Iyaba abo bakorana nayo ari abantu bakoresha akaryo kose baronse, bagakora ico bajejwe nk'abahizi n'abizigirwa, Imana yohinduye abantu barangura amabanga ahambaye, abantu b'ubwenge n'ijunja. Mu bushobozi bwa Mpwemu Yera benshi bazemera amategeko y'Imana. Bahindukiriye ukuri, bazoba ibikoresho mu minwe y'Imana, bashire abandi umuco. Bazikorera umutwaro udasanzwe ku bw'aba bantu bari muri uyu murwi wirengagijwe. Umwanya n'amahera bizotangwa ku bw'igikorwa c'Umwami, kandi inkomezi n'ubushobozi busha buzokwiyongera kw'ishengero.

Kubera Koruneliyo yagendera inyigisho zose yahawe, Imana yarongoye ibintu ku buryo yashoboye kuronka ukundi kuri. Intumwa

ivuye mu birimba vyo mw'ijuru yarungitswe kuri iyo ntwazangabo y'Umuroma, no kuri Petero kugira ngo Koruneliyo aronke uwushobora kumuyobora ku muco munini. Hari benshi mw'isi yacu bari hafi y'ubwami bw'Imana kuruta uko tuvyibaza. Muri iyi si y'umwiza w'icaha Umwami arafise amabuye y'agaciro, abo azorungikira intumwa ziwe. Ahantu hose hariho abantu bazokwifatanya na Kristo. Benshi bazoha agaciro ubwenge bw'Imana kuruta inyungu zose z'iyi si, kandi bahinduke abatwaramuco b'intungane. Bagpberewe n'urukundo rwa Kristo, bazogobera abandi kuza kuri We. Bene Data bari i Yudaya bumvise ko Petero yagiye mu nzu y'umunyamahanga kandi akigisha abahakoraniye, baratangaye kandi birabababaza. Batinya ko iyo nyifato, yasa kuri bo nk'iyo ukwiyemera gukabije, yari guhava ivuguruza inyigisho yiwe ubwiwe. Igihe bongeye kubona Petero baramuhambariye, bavuga ngo, «ko winjiriye abatakebwe ugasangira na bo.» Petero atangura kubiganira uko vyagenze. Ababwira ivyo yabonye yeretswe kandi abinginga'gutahura ko vyamusaba kutongera kwubahiriza umuhango watandukanya abakebwe n'abatakebwe, no kutonwera kuraba abanyamahanga nk'abahumanye. Ababarira itegeko yahawe ryo kuja mu banyamahangaa, n'ugushika i Kayisariya, n'ingene yahuye na Koruneliyo. Yarabaciriye ku mayange ingingo nyamukuru z'ico kiganiro yagiranye n'iyo ntwazangabo y'abasoda ijana, imubwira ivyo yeretswe bimusaba gutumako Petero.

Avuga ati, «Ngitangura kuvuga, Mpwemu Yera arabamanukira, nk'uko yamanukiye kuri twebwe ubwa mbere. Nibuka rya jambo ry'Umwami Yesu, uko yavuze, ati Yohana yabatirishije amazi, ariko
[74] mweho muzobatizwa na Mpwemu Yera. None ko Imana yabahaye ingabire imwe n'iyo natwe twahawe twizera Umwami Yesu Kristo, jewe ndi iki gishobora gutangira Imana? Bavyumvise, baca baranuma. Bemeye ko inyifato ya Petero yari ihwanye n'integuro y'Imana, kandi ko ivyiyumviro vyabo bigoramye n'inyifato yabo yo gukumira abandi yari iteye kubiri n'iciyumviro c'ubutumwa bwiza, bahimbaza Imana bavuga bati, «Noneho rero Imana ihaye n'abanyamahanga kwihana ngo baronke ubugingo.» Uku niko, ata ngorane zibayeho, ivyiyumviro bigoramye vyasenyuwe, ikumira ryari ryashinzwe n'umugenzo kuva kera rigahebwa, kandi inzira yo kubwira ubutumwa abanyamahanga ikuguruka.

## Ikigabane ca 15: Kuvanwa Mw' Ibohero

*Iki kigabatte gishimikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 12:1-23.*

«Maze nko mur'ico gihe umwami Herode ata mu maboko bamwe bo mw'ishengero ngo abagirire nabi.» Leta ya Yudeya muri ico gihe yari mu minwe ya Herode Agiripa, yatwarira Clawudiya, Umwami w'abami w'Umuroma. Herode kandi yatwara Galilaya. Yari yarakiriye idini ry'Abayuda, kandi vyasa n'uko yihatira gukurikiza imihango y'ivyagezwe vy'Abayuda. Kubera ko yifuza kurabwa neza n'Abayuda, kugira ngo agume mu gikorwa ciwe n'icubahiro, yashigikiye ivyipfuzo vyabo mu guhama ishengero rya Kristo, yinjira mu mazu akanyaga ubutunzi bw'abizera, kandi ashira mw'ibohero abarongozi b'ishengero. Aterera mw'ibohero Yakobo, mwene wabo na Yohana, arungika umuntu wo kumwicisha inkota, nk'uko Herode wundi yari yaciye umutwe wa Yohana uwavugishwa n'Imana. Abonye Abayuda banezerejwe n'utwigoro twiwe, aterera Petero nawe mu mvuto. Mu gihe ca Pasika niho ubwicanyi bwinshi bwakoreka. Igihe Abayuda bibuka ibohorwa ryabo mu Misiri kandi bigira nk'abashishikariye kwubaha ivyagezwe vy'Imana, niko bica n'ingingo y'ivyo vyagezwe mu guhiga n'ukwica abizera Kristo.

Urupfu rwa Yakobo rwateye agahinda n'akababaro gakomeye mu bizera. Babonye Petero atawe mw'ibohero, ishengero ryose ryigira inama yo kwisonzesha no gusenga. Igikorwa Herode yakoze mu kubohesha Petero cashimwe cane n'Abayuda, n'aho bamwe batanezerejwe n'uko babikoze mu mpisho, kuko bibaza ko bamwiciye mu rukinja abizera n'abari ku ruhande rwabo bobatera ubwoba. Nuko Herode aba aragumije Petero, afise umugambi wo kunezereza Abayuda mu nyuma, mu kumwicisha mu rukinja. Ariko bamubwiye ko bitoba vyiza kwicira iyo ntumwa bikovongo imbere y'abantu bose bari bakoraniye i Yerusalemu. Batinya ko igihe abantu bomubona asohokanywe ngo aje kwicwa isinzi ry'abantu bari aho ryoterwa n'akagongwe.

Abaherezi n'abategetsi baratinya kandi ko Petero yokwongera [75]

kugira imihamagaro yiwe yuzuye ubushobozi yari amenyereye gukora kandi yatumye abantu benshi biga ubuzima na kamere ya Yesu - insiguro, ku bw'ivyiyumviro vyarimwo, zatuma ata muntu n'umwe ashobora kuzivuguruza. Ubwira bwa Petero mu kurwanira igikorwa ca Kristo bwari bwatumye abantu benshi bafata ingingo yo kwemera ubutumwa bwiza, kandi abategetsi batinya ko yohava yongera kuboneraho akaryo ko gutanga ubusobanuro bw'ukwizera kwiwe imbere y'isinzi ry'abantu bari baje mu gisagara gusenga, ku buryo boca basaba umwami ko amubohora. Igihe ku bwo imvo nyishi urupfu rwa Petero rwabandanije kwigizwayo gushika Pasika ihere, abizera baronse akaryo gahagije ko gusesa mu mitima no gusenga bashimitse. Basengera Petero urudaca, kuko bibaza ko rudashobora kumusiga. Batahuye ko bashitse ahantu, Imana itabafashije mu buryo budasanzwe, ishengero rya Kristo ryozimangana. Muri uwo mwanya abambaza Imana bava mu mahanga yose bariko barondera urusengero rwari rwerejwe gusengeramwo Imana. Rwarakayangangana n'izahabu n'amabuye y'agaciro, ruboneka mu bwiza butangaje. Ariko Yehova nti yari akiri muri iyo nyubakwa y'igikundiro. Isirayeli nk'ihanga yari yaritandukanije n'Imana yabo. Igihe Kristo, agira arangize igikorwa ciwe mw'isi, yitegereza mu rusengero ubwa nyuma, yavuze ati, «Raba inzu yanyu muyitanywe ari umusaka.» Matayo 23:38. Hambere yari yise urwo rusengero inzu ya Se; ariko igihe Umwana w'Imana yarusohokamwo, Imana yari ivuye burundu muri iyo ngoro yubakiwe icubahiro cayo.

Vyabaye kera umusi wo gupfa kwa Petero urashingwa, ariko amasengesho y'abizera yakomeje kuduga mw'ijuru; kandi igihe bahamagara n'inkomezi n'impuhwe basaba ubufasha, abamarayika b'Imana bariko bararinda iyo ntumwa iri mw'ibohero. Yibutse ingene hambere intumwa zatorotse mw'ibohero, Herode ubu hoho yari yazitiye. Kugira ngo ntibishoboke ko atoroka, bari bashize Petero mu si y'uburinzi bw'abasoda cumi na batandatu, bakuranwa kumurinda ijoro n'umutaga. Mu cumba yari abohewemwo, yari ahagatiwe n'abasoda babiri kandi aboheshejwe iminyororo, umunyororo umwe umwe wose uboheye ku kuboko kw'umwe muri abo basoda. Nti vyashoboka ko anyagara batabimenye. Inzugi z'ibohero zugawe neza, kandi hanze zirinzwe cane, ivyizigiro vyo gutoroka mu buryo bwa kimuntu vyari vyaheze. Ariko aho umuntu agarukira niho Imana ibonera akaryo.

Petero yari yugaraniwe mu kumba kimbwe mu rutare, inzugi zaryo zarakomejwe n'ivyuma; kandi abasoda bari bararahijwe ko batazohirahira ngo batorokeshe umuntu. Ariko ivyuma n'abarinzi b'Abaroma, bitashobora kuneshwa n'umuntu, vyafashije intsinzi y'Imana irushiriza kuba iyihambaye cane mu kubohoza Petero. Herode yari yabanguriye ukuboko Ishoboravyose, kandi yategerezwa gutsindwa bigaragara. Mu kugaragaza ubushobozi bwayo, Imana yari igiye kurokora ubwo buzima bw'agaciro Abayuda bariko bagira imigabo yo kurandura. Ni umusi wa nyuma imbere y'uko bamwica. Umumarayika w'inkomezi arungitswe avuye mw'ijuru kurokora Petero. Za nzugi ntamenwa zari zugaranye uwo mwera w'Imana zuguruka ata kuboko kw'umuntu kuzikozeko. Umumarayika w'Isumbavyose acamwo, maze inzugi ziyugara inyuma yiwe ata gakoma. Yinjira muri ka kumba, asanga Petero aryamye, asinziriye itiro ry'amahoro aturuka ku vyizigiro vyuzuye. Umuco ukikuje uwo mumarayika wuzura muri ako kumba, ariko ntiwavyura iyo ntumwa. Gushika aho yumvise umumarayika amukozeko, kandi yumvise ijwi rivuga ngo, «Va hasi vuba,» niho yikanguye neza ku buryo yashoboye kubona akumba kuzuye umuco wo mw'ijuru, kandi abona umumarayika w'ubwiza butangaje ahagaze imbere yiwe. Apfa kugamburuka iryo jambo abwiwe, kandi ubwo yaterura ibiganza vyiwe ntiyamenya n'ingene ya minyororo yari ku bikonjo vyiwe yakorotse. [76]

Na none rya jwi ry'intumwa yo mw'ijuru rirasubira riti, «Kenyera, kandi wambare inkweto zawe,» maze Petero yongera gupfa kugamburuka, atangarira cane uwo mushitsi kandi yibaza niba yeretswe canke ariko ararota. Wa mumarayika asubira kandi kumutegeka ati, «Ikubireko umutamana wawe maze unkurikire.» Arasohoka, wa wundi Petero atabura ico avuga nawe aramukurikira, ubu hoho ameze nk'ikiragi kubwo gutangara. Barengana abarinzi maze bashikira rwa rugi rw'ivyuma, rurabiyugururira ubwarwo, ba barinzi bo mu nzu n'abo hanze bumira ku birindiro vyabo, ntibabica n'ikanda. Urugi rwa kabiri, narwo nyene rurinzwe imbere n'inyuma, rurashikirwa. Rwiyugurura nk'urwa mbere, n'amapata y'inzugi canke ivyuma bidakomye. Carasohoka, narwo nyene rwiyugara ata gakomye. Biba nk'uko, baca mw'irembo rya gatatu, maze babona bari hanze y'igisagara. Nta jambo ryavuzwe; nta n'ikirenge cumvikanye. Wa mumarayika arasoboka ari imbere, akikujwe

n'umuco ukayangana cane, Petero nawe ntiyamenya ko ivyo umumarayika akoze ari ivy' ukuri, acibaza ko ari mu ndoto, akurikira uwumubohoye. Nuko baca mw'ibarabara rya mbere, maze igikorwa c'uwo mumarayika kirangiye, buno nyene aca arazimangana.

Wa muco wo mw'ijuru urayonga, maze Petero yumva ko ari mu mwiza mwinshi; uko amaso yiwe yamenyera, niko uwo mwiza wagiye ugabanuka, niko kubona ko ari mw'ibarabara wenyene, akayaga gakanye k'ijoro gahuha mu maso yiwe. Maze amenya ko yidegemvya, ko ari mu gace k'igisagara yari amenyereye; amenya ko aho hantu ari aho yahora agendera kandi yibaza ko aho bukera azohabona ubwa nyuma. Atangura kwiyumvira ivyabaye mu mwanya muto uhise. Yibuka ingene yatwawe n'agatiro, abo-
[77] hewe hagad y'abasoda babiri, yakuye isandari n'umutamana wiwe. Ariraba neza asanga arambaye kandi akenyeye. Ibikonjo vyiwe vyari vyariwe na ya minyororo y'ubugesera, abona biridegemvya. Atahura ko umwidegemvyo wiwe atari ukurazirana canke indoto canke ukwerekwa, ahubwo ko ari ukuri kw'umugisha. Ku musi ukurikira yari yiteze gupfa. «Akenge kagarutse, Petero aribwira ati, Noneho menye vy'ukuri yuko Umwami yatumye umumarayika wiwe, akankiza ukuboko kwa Herode, bo n'ivyo ubwoko bw'Abayuda bwari bwiteguye gukora.»

Ya ntumwa ibanza kugana inzu abavandimwe bari bakoraniyemwo kandi muri ako kanya bariko baramusengera bashimitse. «Petero akomanga ku rugi rw'irembo, umukobwa w'umugurano yitwa Rode aja kwumviriza. Amenye jwi rya Petero akanyamuneza kamubuza kwugurura, arirukanga arinjira, ababarira yuko Petero ahagaze kw'irembo. Baramwishura bati, Urasara. Nawe avuga ashimitse ko ari ivy'ukuri. Bati ni umumarayika wiwe. «Ariko Petero ashishikara gukomanga: buguruye baramubona, barumirwa. Arabamama, abiganira uko Umwami Imana yamukuye mw'ibohero.» Nuko Petero «arahava aja ahandi.» Umunezero n'amahoro vyuzura imitima y'abizera, kubera Imana yumvise kandi ikishura amasengesho yabo kandi ikarokora Petero mu maboko ya Herode. Bukeye, isinzi ry'abantu rikorana ngo riratire ijisho ingene bica ya ntumwa. Herode atuma abasoda bakuru mw'ibohero kuzana Petero, yategerezwa kuzanwa aherekejwe n'ibirwanisho bikomeye n'abarinzi, atari gusa kugira ngo ntatoroke, ahubwo kandi ngo batere ubwoba abantu bose bohirahira kumushigikira, ndetse mbere kugira

berekane ubushobozi bw'umwami. Ba barinzi b'imbere y'urugi basanze Petero yatorotse, batekerwa n'ubwoba. Bari babariwe neza ko niyatoroka bazosubira mu kibanza ciwe, kandi ku bw'ivyo bari barikanuye mu buryo budasanzwe. Igihe abo basoda bakuru baza kuraba Petero, ba barinzi bari bakiri imbere y'urugi rw'ibohero, ivyuma vyugarije bikiri uko babiboshe, iminyororo ikiri ku bikonjo vya ba basoda babiri; ariko umufungwa yazimanganye.

Igihe inkuru zashikira Herode ko Petero yatorotse, yaratangaye kandi ishavu rirazirirringa. Avuga ko abarinzi batabaye abizigirwa, maze ategeka ko babica. Herode yari azi ko ata bushobozi bw'umuntu bwatorokesheje Petero, ariko yahisemwo kutemera ko ububasha bw'Imana bwamutesheje umugambi wiwe, ahitamwo kurwanya Imana yemanze. Bidatevye Petero amaze kuva mw'ibohero, Herode yagiye i Kayisariya. Ico gihe yari yo, hari hateguwe isabukuru igendereye kunezereza n'ugutangaza abanyagihugu. Iyi sabukuru yari yitabwe n'abantu bakunda kwinezereza bavuye mu mihingo yose, kandi hari hategekanijwe kurya no kunywa vino. Herode arenguka imbere y'abantu nk'umwami yasharije birengeje kandi yiteguve kuvuga ijambo ry'akataraboneka. Yambaye ikanzu ikayanganako ifeza n'izahabu, ikwega imishwarara y'izuba kandi ikamena amaso y'abayiravye, aboneka nk'igitangaza. Igihagararo ciwe c'umwami n'inkomezi z' imvugo yiwe iryobOye itangaza [78]
abantu. Kubera ko bari bamaze kuborezwa n'agahimbo na vino, babaye nk'abakubiswe n'inkuba n'ibisharizo vya Herode, ndetse n'akaroruhore k'ijambo ryiwe; ku bwo ivyishimo n'umunezero baramutangarira, bati nta muntu yigeze kubaho arabonekako icubahiro n'imvugo nziza nk'iyo. Bongerako bavuga ko naho bahora bamwubaha nk'umutegetsi bidahagije, ahubwo ko uhereye ubu bategerezwa kumusenga nk'imana.

Bamwe muri abo uwu mwanya bumvikana baninahaza umunyavyaha ruhebwa, nta myaka myinshi iheze bari badugije amajwi bavuga ngo dukurireho uwo Yesu! Nabambwe! Nabambwe! Abayuda bari banse kwakira Kristo, uwo impuzu, zisanzwe kandi zahaze inkungugu y'urugendo, yaranzwe n'urukundo rw'Imana. Amaso yabo nti yashobora kubona musi y'uguca bugufi kwo hanze, Umwami w'ubuzima n'ubuninahazwa, naho ubushobozi bwa Kristo bwahishuriwe mu maso yabo mu bikorwa ata muntu n'umwe yashobora gukora. Ahubwo bari biteguye gusenga nk'imana,

uwo mwami yishira hejuru yambaye impuzu z'ifeza n'izahabu zihishije ububi n'umutima w'ubwicanyi. Herode yari azi ko adakwiye namba amashimwe n'icubahiro bamuhaye, ariko yemeye ko abantu bamugira ikigirwamana. Umutima wiwe wiyumvisemwo icubahiro kirengeje, maze ubwibone bumushwara mu maso ubwo yumvise amajwi aduga ati, «Iri n'ijwi ry'imana, ntabwo ari iryo umuntu.» Ariko bidatevye, ibintu vyaramuhindutseko. Mu maso hiwe hariraburaniwe nk'urupfu maze harangwa n'agahinda k'uwuri ku mpfiro. Ibima vy'ivyuya bitangura kumusokorokamwo. Ahagarara gato nk'uwucumiswe n'ububabare buvanze n'ubwoba; maze ahindukiza mu maso hiwe hahindutse umweru kandi hije ngo arabe bagenzi biwe batekewe n'ubwoba, asemerera n'ijwi ryuzuye agahinda n'ukwihebura, ati Wa wundi mwaninahaje nk'imana rurikoreye. Ababara urwo agashinyaguro, bamukura ma maso y'abarorerezi. Mu kanya gashize yari yishize hejuru ahabwa impundu kandi asengwa n'isinzi ry'abantu; ubu noneho atahuye ko yaguye mu maboko y'Umutegetsi akomeye kumurusha.

Aribwa n'ukwicuza; yibuka ingene atahengeshanije guhama abizera Kristo; yibuka n'itegeko ry'ubugesera yatanze ryo kwica Intungane Yakobo, n'umugambi wiwe wo kwica intumwa Petero; yibuka n'ingene mu kababaro kiwe bifatanije n'ishavu ry'uko atashitse ku mugambi wiwe, yari yasutse ukwihora kutagira aho gufatiye ku barinzi b'ibohero. Noneho atahura ko yahangaranye n'Imana, we yahamye ishengero atiziganije. Ntiyaronse igihoza umubiri wiwe imibabaro canke umutima wiwe agahinda, mbere ntavyo yari yiteze. Herode yari azi icagezwe c'Imana kivuga ngo «Ntukagire izindi mana umbangikanya.» Kuvayo 20:3; kandi yari azi ko mu kwemera gusengwa n'abantu yari yujuje igikombe c'ivyaha vyiwe n'ukwikwegerako uburake bukwiye bwa Yehova.

[79] Wa mumarayika yari yavuye mu birimba vyo mw'ijuru kurokora Petero, yari yahindutse intumwa y'uburake n'urubanza kuri Herode. Umumarayika yakubise Petero amuvyura mw'itiro; yakubitishije urushi rutandukanye uwo mwami yigira ibiro biteze, ashira hasi ubwibone bwiwe, kandi azana kuri we igihano c'Ishoboravyose. Herode yapfiriye mu kababaro k'umubiri n'umutima, aronse igihano c'Imana. Iki kimenyamenya c'ubutungane bw' Imana cakoze cane ku bantu. Inkuru z'uko intumwa ya Kristo yabohowe mu buryo bw'igitangaza kandi agakizwa urupfu, ariko uwamuhama

agakubitwa n'umuvumo w'Imana, zasakaye ahantu hose, kandi zabaye ikiraro co kuzana benshi ku kwizera Kristo. Ivyabaye kuri Filipo, yarongowe n'umumarayika avuye mw'ijuru ngo aje guhura n'umuntu arondera ukuri; inkuru ya Koruneliyo, yagendewe n'umumarayika afise ubutumwa bw'Imana; inkuru ya Petero, yari mw'ibohero kandi yaciriwe urwo gupfa, agasohorwa n'umumarayika - ivyo vyose vyerekanye imigenderanire y'ijuru n'isi. Ku mukozi w'Imana uku kugenderwa kw'umumarayika gukwiye kuzana inkomezi n'ubushizi bw'amanga. Uyu musi nk'uko vyari no mu gihe c'intumwa, intumwa zo mw'ijuru zigendagenda mw'isi, zirondera guhoza abababaye, zikingira abanse kwihana, zizana imitima y'abantu kuri Kristo. Ntidushobora kubabona n'amaso yacu; ariko kandi bari kumwe natwe, baturongora, bayobora, badukingira.

Ijuru rifatanijwe n'isi na ca curirizo c'igitangaza, ishimikiro ryaco riri kw'isi, iherezo naryo rigakora ku ntebe y'ubwami y'Isumba vyose. Abamarayika bama bariko baraduga kandi bamanuka ico curirizo gikayangana, batwaye mw'ijuru kwa Data amasengesho y'abakenye n'abacitse intege, bongera bazana imigisha n'ivyizigiro, ubushizi bw'amanga n'ubufasha ku bana b'abantu. Abo bamarayika bakikuza umutima n'umuco wo mw'ijuru, bakaturerura imbere y'ibitabonwa kandi bihoraho. Nti dushobora kubabona n'amaso yacu ya kimuntu; ibintu vyo mw'ijuru dushobora kubibonesha amaso ya Mpwemu gusa. Amatwi ya Mpwemu yonyene ni yo ashobora kwumva ubwiza bw'amajwi yo mw'ijuru. «Umumarayika w'Uhoraho ashagaje impande zose z'abamwubaha, akabarokora.» Zaburi 34:7. Imana ituma abamarayika bayo gukiza ikiza abatoranijwe bayo, akabakingira «ikiza kigendagenda mu mwiza» «N'agatikizo kayogeza mu mashoka.» Zaburi 91:6. Kandi kenshi na kenshi abamarayika barayaze n'abantu nk'uko umuntu aganira n'umukunzi wiwe, maze babajana mu bibanza birimwo umutekano. Kenshi na kenshi amajambo y'abamarayika yasubije intege imitina y'abagororotsi yahororokewe, kandi bagakura ubwenge bwabo ku vy'isi, bakababafasha kubwo kwizera kuraba amakanzu yera, ingori, n'amashami y'intsinzi, abanesheje bazoronka igihe bazokikuza intebe nini yera y'ubwami.

Ni igikorwa c'abamarayika kwegera abari mu mageragezvya, [80]
abababaye, abari mu bigeragezo. Bakora badahumeka ku bwo

abo Kristo yapfiriye. Iyo abanyavyaha barongowe kwishikanira Umukiza, abamarayika badugana inkuru mw'ijuru, maze hakaba umunezero mwinshi mu ngabo zo mw'ijuru. «Mw'ijuru bazonezerwa batyo umunyavyaha umwe yihanye, bakamurutisha abagororotsi mirongo icenda n'icenda badakeneye kwihana.» Luka 15:7. Icegeranyo kijanwa mw'ijuru, c'akigoro kacu kose ko kwigizayo umwiua no gukwiragiza hose umuco wo kumenya Kristo. Ubwo ivyakozwe biratwa imbere ya Data, umunezero ushwara mu ngabo zose zo mw'ijuru. Abahambaye n'abakomeye bo mw'ijuru bariko bitegereza intambara, mu bihe bisa n'uko vyoca intege- abasuku b'Imana bariko bararwana. Uturere dusha turiko turagarurwa, ivyubahiro bisha bigacakirwa, ubwo Abakristo, bazuoguruka ibendera ru'Umukiza wabo, baja kurwana intambara nziza y'ukwizera. Abamarayika bose bo mw'ijuru bakorera abizera b'Imana bicisha bugufi; kandi uko ingabo z'abakozi b'Umwami hano kw'isi baririmba indirimbo zabo z'amashimwe, niko n'abaririmvyi bo mw'ijuru bifatanya nabo mu kuririmbira amashimwe Imana n'Umwana wayo.

Dutegerezwa gutahura cane igikorwa c'abamarayika. Vyoba vyiza twibutse ko umwana w'Imana wese w'ukuri akorana n'ibiremwa vyo mw'ijuru. Ingabo zitaboneka z'umuriro n'ubushobozi zifasha aboroheje kandi baciye bugufi bizera kandi bakitabaza amasezerano y'Imana. Abakerubi n'abaserafi, n'abamarayika b'inkomezi zirengeye ubwenge, bahagaze i buryo bw'Imana, «bose ni impwemu ziyikorera, zitumwa gukora igikorwa kubw'abazoragwa agakiza.» Abaheburayo 1:14.

## Ikigabane ca 16: Ubutumwa Bwiza Muri Antiyokiya

*Iki Kigabane Gishimikiye ku Vyakozwe n'lntwnwa 11:19-26; 13:1-3.*

Abigishwa bamaze kwirukanwa i Yerusalemu kubwo agahamo, ubutumwa Bwiza bwakwiragiye vuba mu turere tw'inyuma ya Palestina; maze utugwi dutoduto tw'abizera tuboneka mu bigwati binini binini. Bamwe mu bigishwa «baragenda bashika i Foyinike n'i Kupuro, n'i Antiyokiya bamamaza ubutumwa bwiza. Ibikorwa vyabo mu bisanzwe vyagarukira ku Baheburayo n'Abayuda b'Abagiriki, baba mu migwi minini muri ico gihe yaboneka hafi mu bisagara vyo kw'isi yose. Hamwe muri ivyo bisagara ubutumwa bwakiririwe neza ni muri Antiyokiya, cari igisagara rurangiranwa mu karere ka Siriya. Urudandazwa rukomeye rwahakorerwa rwari rwakweze abantu benshi muri ico kigwati, bavuye mu mahanga atari amwe. I ruhande y'ivyo, Antiyokiya yari izwi nk'icibare c'abantu bakunda ubuzima bworoshe kandi bakunda kwiryohererwa, kubera amagara meza, ubwiza bw'ibidukikije, [81]
n'ubutunzi, imico kama riutugenegene vyaharangwa. Mu bihe bimwe vy'intumwa cari cahindutse igisagara c'ubusambanyi n'ikibi. Ubutumwa bwiza bwari bwigishijwe muri Antiyokiya ku mugaragaro n'abigishwa bavuye i Kupuro n'i Kurene, baje «bababwira Umwami Yesu.» «Ukuboko kw'Umwami kwabanye nabo,» kandi umwete wabo wazanye ivyamwa. «Abantu benshi barizeye, maze bahindukirira Umwami.» «Inkuru yabo ishika mu matwi

y'ishengero ry'i Yerusalemu, batuma Barunaba ngo ashirwe ashitse muri Antiyokiya.» Ashitse muri uwo murima mushasha, Barunaba yabonye igikorwa cari camaze gukorwa ku bwo ubuntu bw'Imana «aranezerwa, arabahanura bose ngo biyemeze mu mitima kwifatanya akaramata n'Umwami Yesu,»

Ibikorwa vya Barunaba i Antiyokiya vyarahezagiwe cane, maze abigishwa benshi bariyongera yo. Ubwo igikorwa cakura, niko Barunaba yumva ko akeneye ubufasha bubereye ngo atere imbere mu

kwugurura imiryango y'ubushobozi bw'Imana, niko kuja i Taruso kurondera Paulo, imbere gato amaze kuva i Yerusalemu. Yari yamaze igihe akorera mu «ntara za Siriya na Sirisiya n'i Kilikiya,» «yamamaza ivyizerwa yatikiza kera.» Ab'i Galatiya 1 :21, 23. Barunaba yagize amahirwe gutora Paulo no kumwemeza gusubirana inyuma ngo bakorane. Muri ico gisagara c'i Antiyokiya, cuzuyemwo abantu, Paulo yaharonse umurima weze koko. Amashure yiwe, ubwenge n'ukwitanga vyagize ubushobozi bukomeye ku bantu baho n'abagendera muri ico gisagara gisirimutse; kandi yazanye ubufasha nyene Barunaba yari akeneye. Mu kiringo c'umwaka, abo bigishwa babiri bakoranye igikorwa mu bwizigirwa, bafasha benshi kumenya Yesu, Umunyanazareti, Umukiza w'isi. Muri Antiyokiya, niho bwabaye ubwa mbere abigishwa bitwa Abakristo.

Iryo zina baribahaye kuko Kristo ariwe bashira imbere mu kwamamaza ubutumwa bwiza mu nyigisho canke mu biganiro vyabo. Bama na ntaryo bibutsa ivyabaye mu misi y'igikorwa ciwe kw'isi, igihe abigishwa bahezagirwa no kubana nawe. Baguma ubudahengeshanya ku nyigisho no ku bitangaza vyiwe vyo gukiza. Bavugana ubwoba n'amarira ivyo akababaro kiwe mu murima wa Getsemane, ingene bamuguze, urubanza rwiwe n'urupfu rwiwe, ukwihangana n'ukwicisha bugufi yihanganiranye agasuzuguro n'ihohoterwa yakorewe n'abansi biwe, n'imbabazi z'Ubumana yavuganye asengera abamutoteza. Izuka ryiwe n'iduga ryiwe mw'ijuru, n'igikorwa ciwe mw'ijuru nk'Uwusengera abantu baguye, ni vyo vyigwa banezerwa kugumako. Abapagani ntibabesha koko kubita Abakristo, kuko batangaza Kristo kandi basaba ko amasengesho yabo aja ku Mana aciye kuri We.

[82] Ni Imana yabahaye iryo zina rya Kristo. Iri ni izina rya Cami, rihabwa abo bose bifatanije na Kristo! Iri zina ni ryo Yakobo yanditse mu nyuma avuga ati, «None abatunzi si bo babatwaza amanyama, bakaba ari bo babakwega babajana mu manza ? Si bo barogota kw'izina ryiza mwitiririrwa?» Yakobo 2:6, 7. Na Petero yavuze ati, «Ariko ni hagira uwuhorwa kuba Umukristo, yoye kumaramara; ariko aheshe Imana icubahiro ku bwo iryo zina.» «Iyo mututswe muhorwa izina rya Kristo, muba muhiriwe: Kuko Mpwemu w'ubwiza, ari we Mpwemu w'Imana aba kuri mwebwe.» Petero 4:16,14.

Abizera b'i Antiyokiya batahuye ko Imana yashimye gukorera mu buzima bwabo, «ikabaha gukunda no gukora ibiyihimbara.» Ab'i Filipi 2:13. Uko baba hagati y'abantu basa n'abatitayeho ibintu vy'ubuzima bw'agaciro kadashira ni ko bagerageza gukwegakwega abantu b'imitima itagira uburyarya, n'ugushingira intahe nziza Uwo bakunda kandi bakorera. Mu gikorwa cabo co kwiyorosha,bize kwisunga ubushobozi bwa Mpwemu Yera kugira ngo ijambo ry'ubugingo rigire inkomezi. Mu ngendo zabo z'ubuzima zitandukanye, bashingira intahe buri musi ukwizera kwabo muri Kristo. Akarorero k'abigishwa ba Kristo b'i Antiyokiya gategerezwa gukurikizwa na buri mwizera wese aba mu bisagara binini binini vy'isi ya none. N'ubwo biri mu nteguro y'Imana ko abakozi batoranijwe bitanga kandi bafise ingabire bategerezwa gucumbika mu bigwati vyuzuyemwo abantu bakahakorera amavugabutumwa ku mugaragaro, ni umugambi wayo na none ko abanywanyi b'ishengero baba muri ivyo bisagara bakoresha ingabire Imana yabahaye mu gikorwa co gukiza imitima. Hari imihezagiro ihambaye iziganirijwe abitanga ku bwo umuhamagaro w'Imana. Ubwo abo bakozi bihatira kwungukira Yesu imitima, bazosanga ko hari abantu benshi batari gushobora gushikirwa mu bundi buryo kiretse biciye mu kigoro n'ubwenge bw'umuntu aje ku giti ciwe.

Igikorwa c'Imana mw'isi uyu musi gikeneye ivyariho bizima vy'ukuri kwa Bibiliya. Abapasitori bejejwe bonyene ntibahagije kuri ico gikorwa co kuburira ibisagara binini. Imana ntiharnagara abapasitori gusa, ahubwo ihamagara n'abaganga, abaforoma, abavugisha ubutumwa ibitabo, abigisha Bibiliya, n'abandi bakorerabushake bitanga, bafise ingabire zitandukanye-bafise ubumenyi bw'ijambo ry'Imana kandi bazi ubushobozi bw'ubuntu bwayo, ngo biteho ubukene bw'ibisagara bitaraburirwa. Igihe kirihuta, kandi hari vyinshi vyo gukora. Igikoresho cose gitegerezwa kuja ku kivi, ngo uturyo twose muri iki gihe dukoreshwe mu bwenge. Ibikorwa vya Paulo afashijwe na Barunaba i Antiyokiya, vyaramukomeje mu cemezo ciwe ko Umwami yari yamuhamagariye igikorwa c'umwihariko co kubwira ubutumwa abapagani. Igihe Paulo yahinduka, Umwami yari yamubwiye ko azoba intumwa y'ababapagani, yo «kubahumura amaso kugira ngo bahindukire [83]
bave mu mwiza baje mu muco, bave no mu bubasha bwa Satani baje ku Mana, bateko baharirwe ivyaha vyabo, baraganwe n'abajejwe

n'ukunyizera.» Ivyakozwe n'Intumwa 26:18. Umumarayika yiyeretse Ananiya yari yavuze kuri Paulo, ko «ari ikintu nitoranirije, ngo ajane izina ryanje imbere y'abanyamahanga n'abami, n'abana b'Isirayeli.» Ivyakozwe n'Intumwa 9:15. Na Paulo nawe inyuma mu vyamubayeko mu bukristo bwiwe, igihe yariko arasenga mu rusengero i Yerusalemu,yari yabonekewe n'umumarayika avuye mw'ijuru, yamubwiye ngo, «Genda, kuko nzogutuma kure, ku banyamahanga.» Ivyakozwe n'Intumwa 22:21.

Gutyo rero Umwami yari yahaye Paulo igikorwa ciwe co kwinjira mu murima wagutse w'abanyamahanga. Mu kumutegura ku bw'ico gikorwa gihambaye kandi kigoye, Imana yaramwiyegereje kandi imwereka ubwiza butagira akagero n'ubuninahazwa bwo mw ijuru. Yahawe igikorwa co guhishura «ibanga ryahoze rihishijwe uhereye kera isi ikiremwa.» (Abaroma 16 :25), «ibanga ry'ivyo igomba» (Abanyefeso 1:9), «iryo, abana b'abantu ntibabimenyeshejwe mu bindi bihe, nk'uko muri iki gihe intumwa ziwe zera n'abavugishwa na We babihishuriwe na Mpwemu; yuko abanyamahanga basangiye natwe ibiragwa, basangiye natwe ivyasezeranywe muri Kristo Yesu ku bwo ubutumwa bwiza: Paulo ati «nacitse umukozi wabwo...Jewe, uwuri mu nyuma y'abera bose, naherewe ubwo buntu kubwira abanyamahanga ubutumwa bwiza bw'itunga rya Kristo ritagira aho riherera; no guserurira bose ico gusangira ibanga ico ari co, ryari rihishijwe, uhereye kera hose, mu Mana kugira ngo noneho abakuru n'abafise ububasha b'ahantu ho mw'ijuru bamenyere kw'ishengero ubwenge bw'Imana bw'uburyo bwinshi, nk'uko imigabo yayo iri, iyo yagabiye kera hose muri Kristo Yesu Umwami wacu.» Abanyefese 3:5-11.

Imana yahezagiye cane ibikorwa vya Paulo na Barunaba mu gihe bamarana umwaka n'abizera i Antiyokiya. Ariko nta n'umwe yari bwerezwe igikorwa c'ubutumwa bwiza ku mugaragaro. Ubu rero hari hageze igihe, aho mu buzima bwabo Rukristo Imana yagira ibashinge gukora igikorwa kigoye, catuma bakenera ubufasha bwose bwashobora gutangwa n'ishengero. «Muri Antiyokiya mw'ishengero ryaho hari abavugishwa n'Imana n'abigisha: Negeru, na Lukiyosi Umunyakurene, na Manayeni, . . .na Sauli. Bariko barasenga Umwami Imana bisonzesheje, Mpwemu Yera avuga ati, Ni mundobanurire Barunaba na Sauli, bankorere igikorwa nabahamagariye.» Imbere y'uko zirungikwa, nk'abavugabutumwa mu bapa-

gani, izi ntumwa zeguriwe Imana mu masengesho no kwisonzesha, n'ukurambikwako ibiganza. Gutyo rero bari bahawe uburenganzira n'ishengero, atari ubwo kwigisha gusa, ahubwo n'ubwo kubatiza [84] no gutunganya amashengero, bafise ububasha bwose buvuye ku burongozi bw'ishengero.

Ishengero Rukristo ry'ico gihe ryinjiye mu bihe bikomeye. Igikorwa co kwamamaza ubutumwa bwiza mu banyamahanga categerezwa gukorwa n'inkomezi nyinshi; kandi inkurikizi ni uko ishengero ryari rigiye gukomezwa n'umwimbu mwinshi w'abantu bahindukiriye Kristo. Intumwa zari zagenywe ngo zirongore iki gikorwa, zari zigiye kwikekwa, kwiyumvirwa nabi, no gusharikwa. Inyigisho zabo zerekeye ihomvorwa «ry'igihome co hagati» (Abanyefeso 2:14) cari catandukanije uhereye kera Abayuda n'abanyamahanga categerezwa gufatwa nk'inyigisho z'ibinyoma, kandi ububasha bwabo nk'abakozi b'ubutumwa bwiza bukavuguruzwa n'abarwanira idini benshi b'Abayuda.Imana yabonye imbere y'igihe ingorane abasuku bayo bazohura nazo, kandi, kugira ngo arikingire intambamyi, ibwira ishengero mw'ihishurirwa ngo rirobanure izuba ryaka abantu bajejwe kuvuga ubutumwa bwiza. Kubarobanura imbere y'abantu bose kwari ukwemeza ko batowe n'Imana ngo batware inkuru nziza ku banyamahanga.Paulo na Barunaba bari barahawe ico gikorwa n'Imana ubwayo, kandi kurambikwako ibiganza nta buntu busha canke ubushobozi busha vyabongeye, kwari ukwemeza igikorwa batorewe, n'ububasha bwo kukirangura. Kubwo uwo muhango, ikidodo c'ishengero cashizwe ku gikorwa c'Imana. Ku Bayuda, uyu muhango wari uhambaye. Igihe umuvyeyi w'Umuyuda yahezagira abana biwe yabarambikako ibiganza, n'icubahiro cinshi. Mu gihe igitungwa catangwako ikimazi, ikiganza c'uwahawe ububasha bwo kuba umuherezi carambikwa ku mutwe w'ico kimazi. Kandi igihe abavugabutumwa b'ishengero ry'abizera i Antiyokiya bashira ibiganza kuri Paulo na Barunaba, ku bwo ico gikorwa basavye Imana gusuka imigisha kuri izo ntumwa zatoranijwe, mu gikorwa c'umwihariko bari bahamagariwe. Mu bihe vyakurikiye, umuhango wo kurobanura mu kurambikako ibiganza waratituwe; bawuhaye agaciro katajanye n'ico gikorwa, nk'uko umenga abarobanuwe babanza guhabwa ubushobozi, bagaca buno nyene bashobozwa gukora igikorwa ico ari co cose kijanye no kuvuga ubutumwa. Ariko mu kurobanura izo ntumwa zibiri, nta na-

hamwe herekana ko bahawe ubushobozi runaka kubwo kurambikwako ibiganza gusa. Handitswe gusa kurambikwako ibiganza n'ico vyamaze ku gikorwa cabo muri kazoza.

Ibijanye no kurobanurwa kwa Paulo na Barunaba kwakozwe na Mpwemu Yera kubwo igikorwa c'umwihariko, vyerekana ko Umwami akorera mu bo yashinze mw'ishengero ryiwe ritunganijwe. Mu myaka yaheze, igihe Umukiza ubwiwe yamuhishurira umugambi w'Imana, Paulo yaciye ajanwa mu Bakristo b'ishengero risha ry'i Damasiko. Ikigeretseko, ishengero ry'aho hantu ntir-
[85] yarekewe igihe kirekire mu mwiza ku bijanye n'ivyashikiye uwo Mufarisayo yahindutse. Ubu naho, igihe igikorwa Imana yabahaye categerezwa gukorwa ku buryo bwuzuye, Mpwemu Yera atanga kandi igishingantahe kijanye na Paulo nk'igikoresho catoranijwe co gutwara ubutumwa bwiza mu bapagani, aha ishengero igikorwa co kumurobanura, we n'uwo vyakorana. Ubwo abarongozi b'ishengero muri Antiyokiya «basenga Umwami, kandi bakisonzesha, Mpwemu Yera yarobanuye Barunaba na Sauli kubwo igikorwa nabahamagariye.»

Imana yagize ishengero kw'isi umuringoti w'umuco, kandi muri wo ishikiriza imigambi yayo n'ubugombe bwayo. Ntiha umwe mu basuku bayo ibintu imwihereranije ku giti ciwe canke ibiteye kubiri n'ivyo. iha ishengero. Mbere ntimenyesha umuntu umwe ivyo yifuriza ishengero ryayo ryose, maze ngo irekere ishengero -umubiri wa Kristo- mu mwiza. Mu burongozi bwayo, ihuza abasuku bayo n'ishengero ryayo, kugira biyizigire gake ubwabo, ahubwo bizigire abandi, abo iriko irarongora ngo bateze imbere igikorwa cayo. Hamye haba mw'ishengero abantu bagoramiye kuba ba nyamwigendako. Basa nk'abatabona ko ka gatima ko kwigendako gashobora gutuma umuntu ashira ivyizigiro vyinshi muri we ubwiwe, akizigira ivyiyumviro vyiwe aho kwubaha impanuro n'ugushira hejuru ivyiyumviro vya bene Se, na cane cane abo yatoye ngo barongore ubwoko bwayo. Imana yahaye ishengero ububasha budasanzwe, n'ubushobozi ata n'umwe yemerewe gukengera canke gusuzugura, kuko uwokora gutyo yoba asuzuguye ijwi ry'Imana.

Abo bahengamiye kubona ko ivyiyumviro vyabo biri hejuru y'ibindi vyose bari mu kaga gakomeye. Satani akora uko ashoboye kwose ngo atandukanye abo bantu bari imiringoti y'umuco, abo Imana yagenye ngo bubake kandi bagure igikorwa cayo kw'isi.

Gufata minenerwe canke gukengera abo Imana yatoye ngo babe abarongozi mu bijanye no guteza imbere ukuri, ni ukwanka uburyo yatoranije bwo gufasha, gufata mu mugongo no gukomeza abantu bayo.Umukozi wo mu gikorwa c Imana yirengagije abo bantu, akibaza ko ata yindi nzira uwo muco wonyuramwo kiretse kuza uvuye ku Mana ubwayo, aba yishize ahantu ashobora guhendwa n'umwansi. Umwami mu bwenge bwiwe yatunganije ko mu nzira y'ubumwe butegerezwa kuba hagati y'abizera bose, Umukristo azohuzwa n'Umukristo, n'ishengero rigahuzwa n'ishengero. Gutyo, igikoresho c'umuntu kizoshobozwa gukorana n'Imana. Umukozi wese azokwisunga Mpwemu Yera, maze abizera bose bahuzwe mu kigoro gatunganijwe kandi kayobowe neza ngo isi ironke inkuru nziza y'ubuntu bw'Imana.

Paulo yaboneyeho akaryo ko kurobanurwa ku mugaragaro, nk'ikimenyetso c'itanguriro ry'igihe gisha kandi gihambaye mu buzima bw'igikorwa ciwe. Uhereye ico gihe niho mu nyuma yashingiye igenekerezo ry'itanguriro. ry'igikorwa ciwe nk'intumwa mw'ishengero Rukristo. Uwo umuco w'ubutumwa bwiza wakayangana [86] muri Antiyokiya, igikorwwa gikomeye cabandanije gikorwa n'intumwa zari zagumye i Yerusalemu. Buri mwaka mu gihe c'isabukuru, Abayuda benshi bo mu mihingo yose baza i Yerusalemu gusengera mu rusengero. Bamwe muri izo ngenzi bari abagabo bubaha cane Imana kandi biga cane ivyavuzwe n'abavugishwa n'Imana. Bari biteze barindiriye Mesiya yasezeranywe, vyizigiro vy'Isirayeli. Igihe Yerusalemu yari yuzuye abo bashitsi, intumwa zamamaje Kristo n'ubushizi bw'amanga budasanzwe, naho zari zizi ko ziriko zirigerezako. Mpwemu w'Imana yashize ikidodo ku bikorwa vyabo; abantu benshi barizera; maze abo, basubiye mu bihande vy'isi bavuyemwo, bakwiragiza imbuto z'ukuri mu bihugu vyose no mu bantu b'ivyiciro vyose.

Mu bari imbere muri ico gikorwa harimwo Petero, Yakobo, na Yohana, biyumvamwo ko Imana yabatoranije ngo batangaze Kristo mu bo igihugu cabo. Bakoranye ubwenge n'ubwizigirwa, bashingira intahe ivyo babonye n'ivyo bumvise vyose, bisunga «ijambo ryavugishijwe, ryakomejwe kurushiriza.» 2 Petero 1:19, bagerageza kwemeza «inzu ya Isirayeli. . . ko Imana yagize Yesu Umwami na Kristo, uwo Abayuda babamvye.» Ivyakozwe n'Intumwa 2:36.

## Ikigabane ca 17: Abamamaza Inkuru Nziza

*Iki Kigabaiie Gishimikiye kti Vyakozwe n'Inttimwa 13:4-52.*

«Nuko bavuyeyo batumwe na Mpwemu Yera» Paulo na Barunaba, bamaze kurambikwako ibiganza n'abavukanyi i Antiyokiya, «baja i Seleyukiya, bavudukayo bari mu bwato bafata i Kupuro.» Uko niko intumwa zatanguye urugendo rwazo rwa mbere baja kuvuga ubutumwa. Kupuro cari kimwe mu bibanza abizera bari bahungiyemwo agahamo kakurikiye urupfu rwa Stefano. I Kupuro ni ho abantu bamwe bari bavuye baja muri Antiyokiya, «bababwira ubutumwa bwiza bw'Umwami Yesu.» Ivyakozwe n'Intumwa 11:20. Barunaba ubwiwe «yari yavukiye i Kupuro» Ivyakozwe n'Intumwa 4:36); ubu rero, we na Paulo baherekejwe na Yohana Mariko, incuti ya Barunaba, bagendera iryo zinga. Nyina wa Mariko yari yakiriye idini rya Kristo, kandi inzu yiwe i Yerusalemu yari ubuhungiro bw'abigisha. Aho na ntaryo bahaziga kwakirwa no kuharuhukira. Ni muri kimwe mu bihe intumwa zari zagendeye i muhira kwa nyina, Mariko yasavye Paulo na Barunaba ko bomwemerera akabaherekeza mu rugendo rwabo rwo kuja kuvuga ubutumwa bwiza. Yumvise Imana imugiriye ubuntu yifuza kwiyegurira igikorwa c'ubutumwa bwiza.

[87] Zishitse i Salamini, intumwa «zavuga ijambo ry'Imana mu masinagogi y'Abayuda.... Maze bashika i Pafo, basanga umugabo w'umunyamareba, uwuvugishwa w'ibinyoma, yari Umuyuda, izina ryiwe yitwa Bari-Yesu: yagendanira Serugiyo-Paulo, icegera ca Kayisari, umuntu w'ubwenge; uyo ahamagaza Barunaba na Sauh, ashaka kwumva ijambo ry'Imana. Ariko Eluma, uwo munyamareba (izina ryiwe niko risobanurwa) arabahaririza ashaka guhuvya ico cegera ngo nticizere.» Satani ntiyemera ko ubwami bw'Imana bwubakwa kw'isi hatabanje kuba intambara. Inkomezi z'ikibi zirwanya zidahengeshanya intumwa zatowe ngo zikwize hose ubutumwa bwiza, kandi izi nkomezi z'umwiza zikora cane cane iyo ukuri kubwiwe abantu b'icubahiro kandi b'abizigirwa.

Niko vyagenze kuri Serugiyo-Paulo igihe yariko arumviriza ubutumwa bwiza. Ico cegera cari catumyeko intumwa, ngo cumve ubutumwa zari zifise, none ehe, inkomezi z'ikibi zikoreye muri Eluma, uwo murozi, zirondera ivyiyumviro bipfuye nabi ngo zimubuze kwizera, ngo gutyo ziburizeyo umugambi w'Imana. Uku ni ko wa mwansi yaguye akora na ntaryo ngo agumize mu ngabo ziwe abantu b'ijunja, bokomeje igikorwa c'Imana bahindutse bakizera. Ariko umukozi w'ubutumwa bwiza w'umwizigirwa ntakwiye gutinya ko yotsindwa n'umwansi; kuko afise amahirwe yo kwuzuzwa inkomezi zo mw'ijuru ngo ahangarane n'inkomezi zose za Satani.

Naho yasagirijwe na Satani, Paulo yari afise ubushizi bw'amanga bwo gukankamira uwo umwansi yariko arakoreramwo. Iyo ntumwa, «yuzuye Mpwemu Yera,» «amuhanga amaso ati, Wewe wuzuye ubugunge bwose, n'ububi bwose, wa mwana w'umurwanizi we, wa mwansi w'ivyo kugororoka vyose, ntuzoreka kugoreka inzira z'Umwami Imana zigororotse? Nuko raba, ukuboko kw'Umwami Imana kuraguhanamiye, ugira uhume, umare imisi utabona izuba. Ako kanya igipfungu n'umwiza bimwubikizako. Agenda azimagirika arondera uwomufata ukuboko. Ico cegera kibonye ibibaye kirizera, gitangajwe n'ivyo cigishijwe n'Umwami Yesu.»Uwo munyamareba yari yihumye amaso ngo ntiyemere ukuri kw'ubutumwa bwiza kugaragara, Umwami nawe n'ishavu ryera, amuhuma amaso y'umubiri, amubuza kubona umuco w'umurango. Urwo ruhumyi rw'igihe runaka, rwabaye kugira ngo yigishwe yihane, kandi arondere imbabazi z'Imana yababaje cane. Ubwo bwira ntibuce yashizwemwo bwahinduye ubusa amayeri yiwe yo kwankiriza inyigisho ya Kristo. Kubona vyabaye ngombwa ngo azimagirike vyabaye icemezo kuri bose ko ibitangaza intumwa zari zakoze, ivyo Eluma yari yavuze ko ari amayeri y'intoke gusa, vyari vyakozwe n'ubushobozi bw'Imana.Ico cegera, kinyuzwe n'ukuri kw'inyigisho z'intumwa, cakira ubutumwa bwiza.

Eluma ntiyari umuntu yize, ariko yari ashoboye gukora igiko- [88]
rwa ca Satani. Abavuga ubutumwa bwiza bazohura n'uwo mwansi w'amayeri mu mashusho atari amwe. Rimwe na rimwe azoza mw'ishusho y'umuntu yize, ariko kenshi mu yo umuntu ataco azi, abantu Satani yigishije kuroranirwa mu kuba ibikoresho vyo kuyovya abantu. Ni igikorwa c'umukozi wa Kristo kwama arikanuye, atinya Imana kandi akoresha inkomezi zayo. Gutyo ashobora

gutesha umutwe Satani kandi akamunesha mw’izina ry’Umwami Yesu. Maze Paulo n’abari kumwe nawe bavuduka i Pafo bari mu bwato, bafata i Peruga h’i Pamfiliya. Urugendo rwabo rwari ruruhije; bahuye n’ingorane n’ukubura ico bikorako, kandi basagirijwe n’akaga mu mpande zose. Mu bisagara no mu bigwati bacamwo, no mu mayira manini manini atarimwo abantu, bari bazungurutswe n’akaga kaboneka n’akataboneka. Ariko Paulo na Barunaba bari barize kwizigira ubushobozi bw’Imana bushobora kubarokora. Imitima yabo yari yuzuye urukundo bakunda imitima iri mu kaga. Nk’abungere b’abizigirwa barondera intama yazimiye, ntibigeze biyumvira ibibanezezera n’ibiborohereza. Bariyibagira ubwabo, ntibadebukirwa iyo barushe, bashonje canke bakanye. Baraba intumbero imwe gusa-agakiza k’abazimiriye kure y’ubusho.

Aha ni ho Mariko, azigirijwe n’ubwoba n’ugucika intege, yahungabanye akanya mu ntumbero yiwe yo kwitangira igikorwa c’Umwami n’umutima wiwe wose. Kubera atari amenyereye imiruho, yaciwe intege n’akaga n’ukubura icefo ca ruguru mu rugendo rwabo. Yari yakoze neza mu bihe vyiza; ariko noneho, mu ngorane n’akaga vyama bizigiriza umuntu atanguza igikorwa ahantu hashasha, yananiwe kwihanganira imiruho nk’umusoda mwiza w’umusaraba. Ariko yari akeneye kwiga guhangarana n’akaga n’agahamo, n’abansi afise umutima rugabo. Ubwo intumwa zabandanya urugendo, ni ko na none zahura n’ingorane zikomeye. Mariko nawe agatinya, akihebura, yanka gukomeza urugendo, asubira i Yerusalemu. Uku kwidohora kwatumye Paulo abona nabi Mariko, mbere aranamukarira mu gihe gito. Ariko Barunaba we yagerageje kumutahura kuko atari abimenyereye. Yababajwe no kuba Mariko yoheba igikorwa co kuvuga ubutumwa, kuko yamubonamwo ubumenyi bwotuma aba umukozi abereye Kristo. Mu myaka yakurikiye, kuba yashimye gukorana na Mariko vyamugiriye akamaro kanini, kuko uwo musore yitangiye Umwami n’igikorwa co kwamamaza ubutumwa bwiza mu turere tugoye atiziganije. Ku bwo umuhezagiro w’Imana n’inyigisho za Barunaba, yavuyemwo umukozi w’agaciro.

Mu nyuma Paulo yiyujuje na Mariko kandi amwakira nk’umukozi mugenziwe. Mbere yamuratiye abo i Kolosayi nk’uwo basangiye igikorwa» ku bwo Ubwami bw’Imana» kandi «yamumaze umubabaro.» Abo i Kolosayi 4:11. Kandi, gato imbere
[89] y’urupfu rwiwe, yavuze Mariko «nk’uwumufitiye akamaro mu

gikorwa c'ibango ryiwe.» 2 Timoteyo 4 :11. Mariko amaze kugenda, Paulo na Barunaba bagendanye i Antiyokiya h'i Pisidiya, kandi kw'isabato binjira mw'isinagogi y'Abayuda, maze baricara. «Isomwa ry'ivyagezwe n'ivy'abavugishwa n'Imana riheze, abakuru b'isinagogi babatumako bati, Bene Data, ni mwaba mufise ijambo ryo guhanura abantu, ni murivuge.» Nuko ahawe akanya ngo avuge «Paulo ava hasi, arabamama, arababarira ati, Yemwe bagabo b'Isirayeli, namwe abubaha Imana, nimwumve.» Aherako atangura kuvuga ijambo ry'igitangaza. Aherako ababwira ivyo Imana yakoreye abayuda uhereye igihe yabavanye mu buja bwo mu Misiri, n'ingene Umukiza yasezeranywe, no mu ruvyaro rwa Dawidi, kandi ababwira ashize amanga ko «mu ruvyaro rw'uwo, nk'uko Imana yasezeranye, yazaniye Isirayeli Umukiza, niwe Yesu: ataraza, Yohana yigishije ubwoko bwose bw'Abisirayeli ukubatizwa kwo kwihana. Ariko Yohana ariko arasozera urugendo rwiwe, arababaza ati, Mbega mwiyumvira ko ndi nde? Jewe si ndi We. Mugabo, hari uwuzoza inyuma yanje, kandi jewe ntibimbereye no gupfundurura inkweto zo mu birenge vyiwe.» Ababarira n'ubushobozi ko Yesu ari Umukiza w'abantu, na Mesiya yavuzwe n'abavugishwa n'Imana.

Amaze kuvuga ayo majambo, Paulo avuga ati, «Bagabo bene Data, bana bo mu muryango wa Aburahamu, namwe abubaha Imana, ijambo ry'ako gakiza ni twebwe ryatumweko. Kuko ababa i Yerusalemu n'abakuru babo batamwemeye, canke amajambo y'abavugishwa n'Imana asomwa uko Isabato itashe, nico gitucatumye bashitsa ivyo bavugishijwe, hamwe bamutsindisha.» Paulo ntiyakekeranije kuvuga yemanga ukuri kwerekeye ingene abakuru b'Abayuda banse kwakira Umukiza. «Naho babuze inyanduruko yo kumwicisha» iyo ntumwa niko ivuga, «basaba Pilato ko amwicisha. Bamaze gushitsa ivyo yandikiwe vyose, bamumanura ku giti, bamushira mu mva. Ariko Imana iramuzura mu bapfuye: Mu misi myinshi abonekera abari baduganye nawe ava i Galilaya aja i Yerusalemu, abo ni bo bamushingira intahe ubu imbere y'abantu.» Iyo ntumwa irakomeza iti, «Natwe turababwira ubutumwa bwiza bw'ivyasezeraniwe ba sogokuruza, yuko Imana yabishikije kuri twebwe abana babo, hamwe yazura Yesu. Kandi niko vyanditswe muri zaburi ya kabiri, ngo Uri ubura bwanje, uyu musi ndakuvyaye. Kandi kuko yamuzuye mu bapfuye atazosubira mw'iborero, yavuze itya, iti Nzobaha imigisha yera ya Dawidi itazovaho. No muri zaburi

yindi yavuze, ngo Ntuzotanga Uwera wawe ngo aze abore. Yamara Dawidi mu gihe ciwe amaze gukora ivyo Imana igomba, arasinzira, ahamvya ba sekuruza, arabora. Ariko uwo Imana yazuye ntaho yigeze abora.»

Maze noneho amaze kuvuga yemanga ivyashikijwe mu vyo abavugishwa n'Imana bari bamenyereye vyerekeye Mesiya, Paulo ababwira ivyo kwihana n'ukubabarirwa icaha biciye mu bikorwa
[90] vya Yesu Umukiza wabo. Ati, «ni mumenye ko muri uwo ariho mubwiririrwa ivyo uguharirwa ivyaha : kandi niwe atsindanishiriza uwumwizera wese kuri vyose, ivyo mutashoboye gutsindanishirizwa n'ivyagezwe vya Mose.» Mpwemu w'Imana yaherekeje amajambo yavugwa, maze imitima igakanguka. Kubera amajambo y'iyo ntumwa yerekeza ku vyo abavugishwa n'Imana vyo mw'Isezerano rya Kera, akavuga ko ayo majambo yashizwe mu ngiro mu gikorwa ca Yesu Umunyanazareti, yatumye abantu benshi bahitamwo kwifuza kubona Mesiya yasezeranywe. Kandi amajambo yiwe y'ivyizigiro ko «inkuru nziza» y'agakiza yari igenewe Umuyuda n'umunyamahanga ku rugero rumwe yazaniye ivyizigiro n'akanyamuneza abo batari baharuwe nk'abana ba Aburahamu ku bwo umubiri. «Abayuda bamaze gusohoka mw'isinagogi, abanyamahanga barabinginga ngo ayo majambo aze avugwe no kw'isabato izoza.» Abari mw'isinagogi bamaze gusabagira, «benshi mu Bayuda bo n'abatoye idini yabo bakubaha Imana,» bakiriye inkuru nziza bashikirijwe kuri uyo musi, «bakurikira Paulo na Barunaba: nabo bayaga nabo, barababahanura ngo bashishikare kuguma mu buntu bw'Imana.»

Umwete watewe n'amajambo Paulo yavugiye muri Antiyokiya h'i Pisidiya watumye kw'isabato ikurikira iyo, hakoranira «nk'abo mu gisagara bose... kwumva ijambo ry'Imana. Ariko Abayuda babonye ishengero ryinshi, buzura ishari, bahakana ivyo Paulo avuze, barabicokora. «Nuko Paulo na Banmaba bavuga bashize amanga, bati, Vyari bibereye ko ijambo ry'Imana ribanza kubwirwa mwebwe; none ko murishibuye, mukibura ko mutabereye ubugingo budashira, ehe-e duhindukiriye abanyamahanga. Kuko Umwami Imana ariko yatubariye, ati Ndagushizeho ngo ube umuco w'abanyamahanga, kugira ngo n'abo ku mpera y'isi ubashikirize agakiza.» «Abanyamahanga bavyumvise baranezerwa, kandi bashimagiza ijambo ly'Imana: abari baragerewe ubugingo budashira

bose barizera,» Baranezerwa cane kubona Kristo abemera nk'abana b'Imana, maze bumviriza ijambo ryavugwa bafise imitima yuzuye amashimwe. Abizera bari bafise umwete wo gushikiriza abandi ubutumwa bwiza, maze «ijambo ry'Umwami Yesu rikwira ico gihugu cose.» Mu binjana vyashize, ikaramu y'abavugishwa n'Imana yari yarerekanye iryo koraniro ry'abanyamahanga; ariko ayo majambo yavugishijwe yari yarirengagijwe. Hoseya yari yarabivuze ati, «Yamara amaherezo, igitigiri c'Abisirayeli kizongana nk'umusenyi wo ku kiyaga, udashobora kugerwa ku ngero canke guharurika; kandi ahantu babwiriwe, ngo Ntimukiri abantu banje, niho nyene bazobwiririrwa, ngo Muri abana b'Imana nzima.» Kandi ngo: Ni jewe nzomwibibira mu gihuggu, kandi Ntambabazi nzomugirira imbabazi, mbarire Sabantu banje, nti Muri abantu banje; nabo bazovuga, bati Uri Imana yacu.» Hoseya 1:10 ; 2:23.

Umukiza wenyene ubwiwe, mu gikorwa ciwe hano kw'isi, [91]
yarabuye ikwiragizwa ry'ubutumwa bwiza mu banyamahanga. Mu mugani w'uruzabibu yabwiye Abayuda banse kwihana, ati «ubwami bw'Imana muzobwakwa, buhabwe ihanga ryama imbuto zabwo.» Matayo 21:43. Kandi amaze kuzuka yategetse abigishwa biwe kuja «mw'isi yose» kandi bagahindura amahanga yose abigishwa.» Nta n'umwe bategerezwa gusigaza ataburiwe, ahubwo bategerezwa «kwigisha ubutumwa bwiza icaremwe cose.» Matayo 228:19; Mariko 16:15.

Guhindukirira abanyamahanga muri Antiyokiya h'i Pisidiya, ntivyabujije Paulo na Barunaba gukomeza gukorera Abayuda mu bindi bihande, ahashobora kuboneka abantu babumviriza. Mu nyuma, i Tesalonike, i Korinto, muri Efeso, no mu bindi bigwati bihambaye, Paulo na bagenziwe basangiye igikorwa, babwiye ubutumwa bwiza Abayuda n'abanyamahanga. Ariko inkomezi zabo nyinshi bazitumbereje mu kwubaka ubwami bw'Imana mu turere tw'abapagani. Mu bantu bari bafise ubumenyi buke canke batagira namba ubumenyi bw'Imana y'ukuri n'Umwana wayo. Imitima ya Paulo n'abo basangiye igikorwa yagiriye impuhwe ba bandi «batari bafise Kristo, bari batandukanye n'ihanga ry'Abisirayeli, n'abari kure y'amasezerano y'ivyasezeranywe, batagira ivyizigiro, kandi batagira Imana mw'isi.» kubwo igikorwa co kwitanga ata guhumeka intumwa zakoreye abanyamahanga, «abashitsi na bakavantara,» bari «rimwe na rimwe kure cane,» bamenye ko «bigijwe hafi n'amaraso

ya Kristo,» kandi kubwo kwizera ikimazi ciwe c'impongano bagizwe «abasangiye ubwoko n'abera, bo n'abo mu ngoro y'Imana.» Abanyefeso 2:12,13,19.

Uko yatera intambwe mu kwizera, Paulo yakoze adahumeka ngo yubake ubwami bw'Imana mu bari barirengagijwe n'abigisha muri Isirayeli. Na ntaryo yashize hejuru Kristo Yesu «nk'Umwami w'abami, n'uwuganza abaganza.»(1 Timoteyo 6:15), kandi yinginga abizera «gushinga imizi n'ukwubakwa muri We, bashikamishijwe n'ukwizera.» Ab'i Kolosayi 2:7.

Kuri abo bizeye, Kristo ni umushinge utayegayezwa. Kuri iryo buye rizima, Abayuda n'abanyamahanga co kimwe bashobora kuhubaka. Riragutse bihagije kuri bose kandi rirakomeye bihagije ku buryo rishobora kwiremeka uburemere n'umutwaro w'isi yose. Ibi ni ibintu Paulo ubwiwe yatahuye neza. Mu misi ya nyuma y'igikorwa ciwe, igihe yavugana n'umugwi w'abizera bavuye mu banyamahanga bari bagumye mu rukundo rw'ukuri kw'ubutumwa bwiza, iyo ntumwa ibandikira, iti «Mwubatswe... ku mabuye y'itanguriro, ariyo ntumwa n'abavugishwa n'Imana, Kristo Yesu ari we buye rigumya imfuruka.» Abanyefeso 2:19, 20.

Ubwo ubutumwa bwiza bwakwiragira i Pisidiya, Abayuda batizera bi Antiyokiya mu buhumyi bwabo bw'ivyiyumviro bigo-
[92] ramye «bosha abagore b'icubahiro n'abakuru bo muri ico gisagara, bavyurira akadenderezo Paulo na Barunaba, babirukana mu ntara yabo.» Intumwa ntizaciwe intege n'ubwo bubisha; bibutse amajambo y'Umwigisha wabo: Muzoba muhiriwe, aho bazobatuka bakabahama, bakabarementaniriza ibibi vyose babampoye. Munezerwe, muhimbarwe, kuko impera'zanyu ari nyinshi mw'ijuru : kuko ariko bahama abavugishwa n'Imana ba mbere.» Matayo 5:11, 12. Ubutumwa bwiza bwariko burakomeza urugendo, kandi intumwa zari zifise ikizitera intege. Ibikorwa vyabo vyari vyahezagiwe cane mu bantu bo muri Pisidiya na Antiyokiya, kandi abizera bari basize bonyene mu gihe runaka, «buzura akanyamuneza, na Mpwemu Yera.

## Ikigabane ca 18: Kwamamaza Ubutumwa Bwiza Mu Bapagani

*Iki Kigabane Gishimikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 14:1-26*

Bavuye muri Antiyokiya h'i Pisidiya, Paulo na Barunaba baja muri Ikoyiniya. Muri ico kibanza, nk'uko vyagenze muri Antiyokiya, batanguriye ibikorwa vyabo mw'isinagogi y'abo mu bwoko bwabo. Baronse intsinzi ikomeye, «isinzi ry'Abayuda n'Abagiriki barizera.» Ariko muri Ikoyiniya, nk'uko vyashitse mu bindi bibanza intumwa zakoreyemwo, Abayuda banse kwumvira ivyo, bavyura urwanko mu mitima y'abanyamahanga ngo bagirire nabi bene Data.» Ariko intumwa ntizahungabanye ku gikorwa cazo, kuko benshi bakiriye ubutumwa bwiza bwa Kristo. Hagati y'ingorane, ishari, n'ukwikekwa, bakomeje igikorwa cabo "bavuga bashize amanga ku bwo Umwami Yesu.» Kandi Imana «ishingira intahe ijambo ry'ubuntu bwayo, ibaha gukora ibitangaza n'amaboko yabo.» Ibi vyemezo vy'Imana vyakoze ku mitima yari yiteguye kwakira ubutumwa, kandi abahindukiriye ubutumwa bwiza bariyongera. Kumenyekana cane kw'ubutumwa bw'intumwa kwatumye Abayuda banse kwizera buzura ishari n'inzigo, maze bigira inama yo guhagarika ibikorwa vya Paulo na Barunaba bidatevye. Bakoresheje ububeshi n'imvugo y'indenzarugero, batuma abategetsi batinya ko igisagara cose cogwa mu kaga kubera umugumuko. Bavuze ko isinzi ry'abantu ryifatanije n'intumwa kandi ko ivyo vyari ibimenyetso bihishije ibanga runaka. Kubera ivyo birego, abigishwa bakomeje kuzanwa imbere y'abategetsi; ariko amajambo bireguje yarumvikana kandi yarimwo ubwenge, mbere amajambo y'inyigisho zabo yarimwo ubwitonzi kandi yarumvikana, ku buryo yakoze cane ku bantu bakababakira neza. Naho abacamanza bari babafiseko ivyiyumviro bitari vyo kubera amajambo y'ububeshi bari babumviseko, ntibubahutse kubatsindisha. Nta kundi bategerezwa gukora kiretse kwemera ko inyigisho za Paulo na Barunaba zari [93]
zigendereye gufasha abantu kuba beza, n'abanyagihugu gukunda

amategeko, kandi ko ingeso nziza n'umutekano bizokwiyongera igihe inyigisho z'intumwa zokwakirwa.

Kubera intambamyi abigishwa bahuye nazo, ubutumwa bw'ukuri bwaramenyekanye cane; Abayuda babona ko inkomezi zabo zo kubuza igikorwa c'abo bigisha bashasha zatumye gusa abantu bakiriye uko kwizera gusha biyongera. «Abantu benshi bo mu gisagara birema ibice:bamwe baherera ku Bayuda, abandi ku ntumwa.»

Abarongozi bo mu Bayuda bashavujwe cane n'intumbero ibintu vyafashe, ku buryo bahisemwo kubirangirisha umugumuko. Batuma abanyagihugu b'ubwenge buke basara, bavuza induru, batera intureka, maze bayishira ku gatwe k'inyigisho z'abigishwa. Mu kubeshera abigishwa, bari bizeye ko abacamanza baca baja ku ruhande rwabo. Bahiga bavuga ko intumwa zitohabwa akaryo ko kwiregura, kandi ko abanyagihugu batera amabuye Paulo na Barunaba, gutyo ibikorwa vyabo bigaca bihagarara.

Abagenzi b'intumwa naho batari abizera, babavunira akagohe babagabisha ku migambi igayitse y'Abayuda, babasaba kandi kutitega ivyo birandamuke bitabaye ngombwa, bakanyaga amagara. Paulo na Barunaba baherako bava ngaho mu mpisho, baja muri Ikoyiniya, basiga abigishwa ngo babandanye igikorwa bonyene mu gihe runaka. Ariko ntibari bagiye guhera iyo, bari bafise umugambi wo kuzogaruka induru zimaze guhera, maze bagasozera igikorwa batanguye. Mu runganwe rwose, mu turere twose, intumwa z'Imana zahamagariwe guhura n'intambamyi zikomeye, ziterwa n'abahisemwo gutera umugongo umuco uva mw'ijuru. Kenshi, mu gutyoza no kubesha, abansi b'ubutumwa bwiza bagaragaye nk'abatahukanye intsinzi, mu kwugara inzugi intumwa z'Imana zocamwo mu gushikira abantu. Ariko izo nzugi ntizizokwama zugaye ibihe vyose, kandi kenshi, ubwo abasuku b'Imana bagarutse inyuma y'igihe gito kubandanya ibikorwa vyabo, Imana yabakoreye ibihambaye, ibashoboza gushinga ibimenyetso vy'urwibutso rw'icubahiro c'izina ryayo.

Bamaze kwirukanwa muri Ikoniyo n'agahamo, intumwa zagiye i Lusitira n'i Derube i Lukawoniya. Ivyo bisagara ahanini vyari vyubatswemwo n'abapagani, bizera ibintazi. Ariko muri bo, harimwo abifuza kwumva n'ukwakira ubutumwa bwiza. Muri ivyo bibanza no mu micungararo yaho, intumwa zafashe ingingo yo kuhakor-

era, zizeye ko zokwikingira urwikeko n'agahamo k'Abayuda. Muri Lusitira nta sinagogi y'Abayuda yariho, n'ubwo harimwo Abayuda bamwe baba muri ico gisagara. Benshi mu baba i Lusitira basenga mu ngoro yitiririrwa Yupiteri. Paulo na Barunaba baserutse mu gisagara, abantu b'i Lusitira barabazunguruka, nabo babasobanurira [94] ukuri kugaragara kw'ubutumwa bwiza, benshi bifuza kuvanga izo inyigisho n'imyizerere yabo yo gusenga Zeyu. Intumwa zagerageje gushikiriza abo bantu basenga ibigirwamana kumenya Imana Rurema n'Umwana wayo, Umukiza w'abantu. Babanje kubereka ibikorwa bitangaje vy'Imana-izuba, ukwezi, n'inyenyeri, ubwiza bw'urukurikirane rw'ibihe, imisozi ikomeye yiyambitse shelegi, uduti twiza, n'ibitangaza bitandukanye vy'ibidukikije, vyerekana ubuhinga burengeye ubwenge bw'umuntu. Baciye ku bikorwa vy'Ishoboravyose, abigishwa barongora imitima y'abo bapagani kwihweza uwo Mwami ahambaye aganza ivyaremwe vyose. Intumwa zimaze kwerekana ukuri ngenderwako kw'Umuremyi, zabwiye abantu b'i Lusitira ivyo Umwana w'Imana, yaje kw'isi avuye mw'ijuru kubera yakunda abana b'abantu. Baravuze ivyo ubuzima n'igikorwa ciwe, ingene abo yaje gukiza bamwihakanye, urubanza n'ukubambwa kwiwe, izuka ryiwe n'iyurizwa ryiwe mw'ijuru, aho akorera nk'Umuvugizi w'abantu. Nuko, bakoresheje Mpwemu n'ubushobozi bw'Imana, Paulo na Barunaba bavuga ubutumwa bwiza i Lusitira.

Igihe kimwe, Paulo ariko arabwira abantu igikorwa ca Kristo nk'umuganga w'abarwaye n'abari mu kababaro, abona mu bariko baramwumviriza ikimuga kimuhanze amaso cumviriza kandi cizeye amajambo yiwe. Umutima wa Paulo wuzura impuhwe kubw'uwo muntu w'akababaro, abona ko «afise ukwizera kwo gukizwa.» Mu maso y'iryo sinzi ry'abasenga ibigirwamana, Paulo ategeka ico kimuga guhaguruka. Gushika ubu ico kimuga cashobora kwicara, ariko noneho kigamburukira itegeko rya Paulo, maze gishobora guhagarara ku birenge vyaco ubwa mbere kuva kibaho. Inkomezi zazananye n'aka kigoro ko kwizera, maze umuntu yari ikimuga»arabaduka, aratambuka.» «Abantu babonye ico Paulo akoze, bavuga n'ijwi rirenga mu Kinyalukawoniya, bati Imana zitumanukiyemwo zishushanije n'abantu.» Aya majambo yari ahuye n'umugenzo n'imyizererere yabo yemeza ko rimwe na rimwe imana zigendera abantu kw'isi. Barunaba bamwita Zeyu, se

w'Imana, kubera ubwiza bwayo butangaje, igihagararo cayo c'ijunja, n'ubugwaneza n'ukwitanga vyaboneka mu maso hayo. Paulo nawe biyumviye ko ari Herume, kuko ari we «yari imvuzi», afise umwete kandi abangutse, azi kuvuga agabisha kandi ahanura.

Abanyalusitira, kugira ngo bagaragaze amashimwe yabo, basavye umuherezi wa Zeyu guha icubahiro intumwa, maze «azana amapfizi n'imyishwa, agira acumite ikimazi, we n'abakoraniye ngaho.» Paulo na Barunaba, bari bibajije ko baronse ahantu hitaje n'aho kuruhukira, ntibari bamenye izo nteguro. Ariko bidatevye, bakangurwa n'amajwi y'indirimbo, n'umunezero w'igishika c'amajwi y'isinzi ry'abantu bari baje mu nzu babamwo. In-
[95] tumwa zimaze gutohoza zikamenya icabazanye, n'urwo rwamo rw'umunezero «bitantamurirako impuzu zabo, bitera mu bantu,» bizera ko ivyo bija kubabuza ico bagendereye. Paulo asemerera n'ijwi ryarengeye urwamo rw'abantu, abasaba kumwumviriza; buno nyene urwamo ruca rurahagarara, avuga ati: «Yemwe bagabo, ni iki gitumye mugira mutyo ? Natwe turi abantu, tumeze nka mwe, kandi tubabwira ubutumwa bwiza, ngo mureke ivyo bitagira ikimazi, muhindukirire Imana nzima, yaremye ijuru n'isi n'ikiyaga n'ibirimwo vyose, niyo yaretse -amahanga yose mu bihe vyaheze ngo bagendere mu nzira zabo. Ariko nti yabirekeye ngaho, itagira ikiyishingira intahe, kuko yama ibagirira neza, ibaha imvura iva mw'ijuru, n'ibihe vy'ivyimburo vyiza, ibahaza ivyo umunezero.» Nti bitayeho amajambo y'intumwa yabiyamirije ngo ntibababafate nk'imana, nti banitayeho utwigoro Paulo yagize arongora ubwenge bw'abo bantu ku Mana nyakuri ko ari yo yonyene ibereye gusengwa; hari hasigaye gatoya gusa ntibabe bakibuza ishengero kubacumitira ikimazi. Mu vyo ukuri bari bizeye neza ko abo bantu bari utumana koko, ku buryo bitaboroheye kwemera ko bihenze. Ivyanditswe vyera bivuga ko «habuze gato ngo banke.» Abanyalusitira biyumviriye ko biboneye n'amaso yabo ubushobozi butangaje bw'intumwa. Bari babonye ikimuga kitari carigeze gutambuka, gisimba kinezerewe cuzuye inkomezi. Hakenewe ko Paulo abumvisha, akanabasigurira igikorwa ciwe na Barunaba, nk'ivyariho vy'Imana yo mw'ijuru n'Umwana wayo, Umuganga mukuru, kugira ngo abantu bagondozwe guheba ico bari bagiye gukora.

Ibikorwa vya Paulo na Banmaba i Lusitira nti vyatevye kwankirizwa n'indyadya «z'Abayuda zavuye muri Antiyokiya no muri

Ikoniyo,» bamaze kwumva ingene igikorwa c'intumwa cateye imbere mu Banyalukawoniya, bafashe ingingo yo kubakurikira ngo babahame. Bashitse i Lusitira, abo Bayuda barashoboye gutera mu mitima y'abantu umutima mubi wari wabaranga ubwabo. Bakoresha amajambo y'ububeshi n'ukudodobereza ba bantu mu kanya bari bafashe Paulo na Barunaba nk'utumana, babemeza ko mu vyo ukuri intumwa zari abicanyi babi kandi ko zibereye gupfa. Ka kababaro Abanyalusitira bagira kubera ko bankiwe amahirwe yo gutangira ibimazi intumwa, kabateguye kubahindukirira n'inkomezi zingana n'izo bari bakoresheje babamamaza nk'utumana. Bohejwe n'Abayuda, bategura kubatera ku nguvu. Abayuda bababariye ko badakwiye kureka ngo intumwa zivuge, bavuga ko igihe bobareka ngo bavuge borogesha abantu amajambo yabo. Bidatevye, imigambi y'ubwicanyi y'abansi b'ubutumwa bwiza ishirwa mu ngiro. Ku bwo gukoreshwa n'umubi, Abanyalusitira bafatwa n'ishavu rya Satani, maze bafata Paulo bamutera amabuye ata mbabazi. Iyo ntumwa yibwiye ko ivyayo birangiye. Urupfu rwa Stefano, n'uruhara yabigizemwo, vyamuje mu mutima bifise inkomezi. Yuzuye ibikomere, ahungabana ku bwo ububabare, yikubita hasi, maze vya biran- [96]
damuke «bimukwegera hanze y'igisagara vyibaza ko yapfuye.» Muri ico gihe c'umwiza n'amageragezwa, abizera b'Abanyalusitira, bari bizeye Yesu ku bwo igikorwa ca Paulo na Barunaba, bagumye ari abizigirwa n'abanyakuri. Ukwo kurwanywa kwuzuye ubujuju, n'ako gahamo k'ubwicanyi vy'abansi babo, ntaco vyamaze kiretse kwemeza ukwizera kwabo bavukanyi bitanze; maze, mu kaga no gushinyagurirwa, bagaragaje ubwizigirwa bwabo mu kwegera uwo bibaza ko yavuyemwo impwemu. Mbega ingene batangaye igihe babona iyo ntumwa ivura umutwe hagati y'amarira y'agahinda kabo, maze igahaguruka ininahaza Imana. Ku bizera, iri zuka ry'umusuku w'Imana batari biteze ryabaye igitangaza c'ubushobozi bw'Imana, riba nk'ikidodo co mw'ijuru co kwemeza ihinduka ryabo mu kwizera. Baranezerwa buzuye akamwemwe kadasanzwe, bahimbaza Imana bafise ukwizera gusha.

Muri abo bari bakiriye ubutumwa bwiza i Lusitira kandi bari biboneye n'amaso yabo imibabaro ya Paulo, harimwo umuntu umwe yahavuye avamwo umukozi wa Kristo akomeye kandi yari yiteze gusangira n'iyo ntumwa amageragezwa, n'umunezero wo kuba uwuzotanguza igikorwa mu turere tugoye. Uwo musore yari umusore

yitwa Timoteyo. Igihe Paulo yakwegerwa hanze y'igisagara, uwo mwigishwa w'umusore yari umwe mu bahagaze i ruhande y'uwo mubiri wasa n'ikiziga, kandi yamubonye yazutse, yuzuye ibikomere n'amaraso, ariko aninahaza Imana kuko yari yagiriwe amahirwe yo kubabara ku bwa Kristo.

Umusi wakurikiye baraye bamuteye amabuye, intumwa zarahagurutse zija i Derube, aho igikorwa cabo cahezagiwe, maze abantu benshi bakira Kristo nk'Umukiza wabo. Ariko, «bamaze kubwira ubutumwa bwiza abantu b'ico gisagara, kandi bakigisha benshi,» yaba Paulo canke Barunaba, nta n'umwe yanezerejwe no kuja gukorera ahandi adakomeje ukwizera kw'abakiriye agakiza, abo vyari vyabaye ngombwa ngo babasige bonyene mu gihe runaka mu bibanza bari baherutse gukoreramwo. Nuko rero, ata bwoba, «basubira i Lusitira, no muri Ikoniyo na Antiyokiya, bakomeza imitima y'abizera, babinginga kuguma mu kwizera.» Benshi bari bakiriye inkuru nziza y'ubutumwa, ndetse bemera gutukwa no kurwanywa. Abo rero intumwa zategerezwa kubakomeza mu kwizera, ngo igikorwa cakozwe kibandanye. Nk'uko nyene ari ikintu gihambaye mu gukura mu vya Mpwemu ku bakiri basha mu kwizera, intumwa zitondeye cane gukingira umutekano w'ubutumwa bwiza. Amashengero yarashinzwe ku mugaragaro mu bibanza vyose muri Lukawoniya na Pisidiya ahari abizera. Abarongozi baratowe muri buri shengero, hashingwa urutonde rwiza n'inyifato yotuma abizera baroranirwa mu vya Mpwemu. Ibi vyari bijanye n'umugambi
[97] w'ubutumwa bwiza, wo gukoraniriza mu mubiri umwe abizera Kristo bose, kandi uyu mugambi Paulo yitwararitse kuwukurikiza mu gikorwa ciwe. Abakiriye Kristo nk'Umukiza mu bibanza vyinshi ku bwo igikorwa ciwe, mu gihe kibereye batunganijwe nk'ishengero. N'igihe abizera bari igitigiri gito, ivyo vyarakozwe. Abakristo rero bigishijwe gufashanya, bibuka isezerano, «Aho babiri canke batatu bazokoranira mw'izina ryanje, nzoba hagati yabo.» Matayo 18:20.

Kandi Paulo ntiyibagiye amashengero yashinze. Kwitwararika ayo mashengero vyagumye mu mutima wiwe nk'umutwaro ukomeza kwiyongera. Naho kaba ari akagwi gatoya, kaguma kamuraje ishinga. Yitwararitse.udushengero duto duto n'urukundo rwa kivyeyi, atahura ko dukeneye umwitwarariko udasanzwe kugira ngo abizera bashikame mu kuri no kwigishwa kugira umwete, n'utwigoro tuzira ukwikunda ku bwo ababakikije. Mu twigoro

twose bagira ku bwo igikorwa, Paulo na Barunaba bagerageza gukurikira akarorero ka Kristo ko kwitanga, bakorana umwete n'ubwizigirwa ku bwo imitima. Bama bari maso, bafise umwete, bakora badahumeka, batarondera kwiyoroherereza canke kwinezereza, ahubwo basenga badahengeshanya kandi bakora, babiba imbuto y'ukuri. Kandi uko zabiba izo mbuto, intumwa zitondera guha abafashe ingingo yo guhagarara ku ruhande rw'ubutumwa bwiza inyigisho z'agaciro ntangere. Uyu mutima wo kwitanga n'ugutinya Imana, wakoze ku mitima y'abo bigishwa basha ku buryo batazibagira agaciro k'ubutumwa bwiza.

Igihe abantu buzuye kazoza kandi bashoboye bahindukira Imana nk'uko vyabaye kuri Timoteyo, bagerageza kubereka akamaro ko gukora mu ruzabibu rw'Imana. Kandi igihe intumwa zabasiga zikaja mu kindi kibanza, ukwizera kw'abo bantu ntikwahungabana, ahubwo kwariyongera. Bari bigishijwe neza mu nzira y'Umwami, kandi batojwe indero yo gukora ata kwikunda, bafise umwete, bihangana, ku bwo agakiza k'abantu. Izi nyigisho z'Abakristo bashasha zabaye ngirakamaro mu ntsinzi paulo na Barunaba bagize, ubwo bavuga ubutumwa bwiza mu turere tw'abapagani. Urugendo rwa mbere rwo kuja kuvuga ubutumwa rwari rwegereje kurangira. Bamaze kuragiza Umwami ayo mashengero yari ahejeje gushingwa, intumwa zija i Pamfiliya, «kandi bamaze kuvuga ijambo ry'Imana i Peruga, bamanuka muri Ataliya, bavudukayo bari mu bwato baca bafata muri Antiyokiya.»

[98]

# Ikigabane ca 19: Umuyuda N' Umunyamahanga

*Iki kigabane gishimikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 15:1-35.*

Bavuye muri Antiyokiya i Siriya, aho bari bavuye barungitswe ngo baje kuvuga ubutumwa, Paulo na Barunaba baboneyeho akaryo ko gukoranya ishengero, babiganira ivyo Imana yakoranye nabo vyose, n'ingene yugururiye abanyamahanga urugi rwo kwizera.» Ivyakozwe n'Intumwa 14:27. Ishengero ry'i Antiyokiya ryari rinini kandi rikura. Wari umutima w'igikorwa c'ivugabutumwa, umwe mu migwi minini y'abizera b'Abakristo. Abakristo baho bari bagizwe n'abantu bava mu migwi itandukanye, yo mu Bayuda n'Abanyamahanga. ‚Igihe intumwa zifatanya n'abavugabutumwa n'abakorerabushake i Antiyokiya bagerageza kuzana imitima kuri Kristo, Abayuda bamwe bakomoka i Yudeya «bo mu mugwi w'Abafarisayo» baroranirwa mu kwinjiza ikibazo kitatevye kuzana ibihari mw'ishengero, no gutera uruhagarara abizera bakomotse mu bapagani. Abo bigisha bumiye ku migenzo ya Kiyuda, bavuga bashize amanga ko kugira umuntu akizwe ategerezwa gukebwa no gukurikiza imihango yose y'ivyagezwe. Paulo na Barunaba bahangana n'iyi nyigisho y'ikinyoma, kandi babuza ko lyo nyigisho igezwa ku banyamahanga. Ku rundi ruhande, benshi mu bizera b'Abayuda b'i Antiyokiya bashira imbere ingingo ya bene Data bavuye i Yudeya. Abayuda bahindutse Abakristo nti bari biteguye kujana vuba vuba n'ukuntu Imana yagenda yugurura inzira. Ibikorwa vy'intumwa mu banyamahanga vyagaragaje ko abahindutse bavuye mu Banyamahanga barushiriza kwiyongera kuruta abavuye mu Bayuda. Abayuda batinya ko ni bava ku mihango y'ivyagezwe vyabo ntibababihambirire ku banyamahanga nk'itegeko ntabanduka ryo kubarekurira kwinjira mw'ishengero, akaranga kabo k'Ikiyuda, kamye kabatandukanya n'ayandi mahanga, kazohava kazimangana muri abo bakiriye ubutumwa bwiza.

Abayuda bari bamye na ntaryo bishira hejuru ku bwo imihango yabo bategetswe n'Imana, kandi benshi mu bahindukiriye

Kristo bakomeje kwiyumvira ko kubera Imana yaberetse uburyo bwo gusenga, ntivyoshoboka ko yemera ihinduka iryo ari ryo ryose. Bashimitse kuvuga ko ivyagezwe n'imihango y'Ikiyuda itegerezwa kwinjizwa mw'idini ya Gikristo. Baratevye gutahura ko ibimazi vyose vy'impongano atakindi vyari bigendereye kiretse gushushanya urupfu rw'Umwana w'Imana, ku buryo muri rwo ishusho yahwanye n'ico yashushanya, kandi ko inyuma y'urwo rupfu imigenzo n'imihango ya Mose itari igihambiriwe ku bantu. Paulo atarahinduka, yiraba nk'inziramugayo «Ku vy'ukugororoka kuzanwa n'ivyagezwe.» Ab'i Filipi 3:6. Ariko amaze guhinduka mu mutima yatahuye neza igikorwa c'Umukiza nk'Umucunguzi w'abantu bose, abanyamahanga n'Abayuda, kandi yiga gutandukanya ukwizera kuzima n'umugenzo w'idini. Kubw'umuco [99]
w'ubutumwa bwiza, imihango n'integuro zo gusenga vya kera vyari vyahawe Isirayeh vyagize ubusobanuro busha kandi bwimbitse. Ivyari ibitutu vyategerezwa guhita, maze ababa mu gihe c'ubutumwa bwiza bakabikurwako. Ariko amabwirizwa cumi y'Imana, Paulo yakomeje kuyitondera mu buryo bwa Mpwemu no mu buryo bw'inyuguti. Mw'ishengero ry'i Antiyokiya, ikibazo co gukebwa cazanye ibihari n'uruhagarara. Vyabaye kera, abizera, ku bwo gutinya ko ivyo bihari bibandanije vyohava bizana ukwicamwo ibice, bafata ingingo yo gutuma i Yerusalemu Paulo na Barunaba hamwe n'abandi barongozi b'ishengero, ngo bashire ico kibazo imbere y'intumwa n'abakurambere. Bategerezwa kuhahurira n'intumwa zivuye mu mashengero atandukanye, hamwe n'abaje i Yerusalemu mu masabukuru yari yimirije. Muri ico gihe ibihari vyose vyategerezwa guhagarara kugeza habonetse ingingo ya nyuma ivuye aho bazobishira mu nama ya bose. Iyo ngingo rero yategerezwa gukurikizwa n'abantu bo mu mashengero yo mu mihingo yose.

Mu nzira baja i Yerusalemu, intumwa zagendeye abizera mu bisagara baciyemwo, maze babakomeza mu kubabwira ivyabashikiye mu gikorwa c'Imana n'ihinduka ry'abanyamahanga. I Yerusalemu, intumwa z'i Antiyokiya zahwanye na bene Data bavuye mu mashengero menshi, bari bakoranye ku bwo inama rusangi, maze bababwira intsinzi baronse mu banyamahanga. Bababwira mu ncamake akajagari katewe n'Abafarisayo bahindutse bagiye i Antiyokiya bakemanga ko kugira abanyamahanga bakizwe bategerezwa

gukebwa no kwitondera ivyagezwe vya Mose. Ico kibazo carizwe neza mu nama ya bose. Hamwe n'ico kibazo kijanye no gukebwa hari n'ibindi vyishi bikeneye kwihwezwa neza. Kimwe muri vyo cari cerekeye uko twokwifata imbere y'inyama z'ibitungwa vyashikaniwe ibigirwamana. Bamwe mu banyamahanga bahindutse hari ababana n'abantu b'ubwenge buke bakurikira ibintazi bashikanira ibimazi ibigirwamana. Abaherezi b'izo nsengero z'ibigirwamana baraheza bakagurisha ibisigaye ku vyo batanzeko ibimazi, maze Abayuda bagatinya ko abanyamahanga bahindutse bohava batukisha idini ya Gikristo mu kugura inyama zashikaniwe ibigirwamana, gutyo bakaba mu nzira nk'iyo basasiye indava imigenzo y'abasenga ibigirwamana.

Ikigeretseko, abanyamahanga bari baramenyereye kurya inyama z'ibikoko binizwe, kandi Abayuda bobo bari barahawe n'Imana inyigisho ko iyo ibikoko bibazwe bigenewe kuribwa bategerezwa kwitonda bakavanamwo amaraso yose; bitari uko, iyo nyama yafatwa nk'iyihumanye.

Imana yari yahaye Abayuda ayo mategeko kubwo gukingira amagara yabo.

[100] Abayuda babifata nk'icaha gukoresha amaraso nk'igifungurwa. Amaraso bayafata nk'ubugingo, kandi ko gusesa amaraso yari ingaruka y'icaha. Abanyamahanga bobo, bafata amaraso y'ibimazi bakayakoresha mu nteguro y'ibifungurwa. Abayuda ntibemera ko bategerezwa guhindura imigenzo bari bakiriye barongowe n'Imana. Uko rero ibintu vyari bimeze, Umuyuda n'umunyamahanga bicaye ku meza ngo basangire, Umuyuda yiyumva ko atsitajwe n'umunyamahanga.

Abanyamahanga, na cane cane Abagiriki, ntaco bari bitayeho, kandi vyari no gushika ibara rikaduka, abantu batahindutse mu mutima bakakira ukwizera batahevye ibibi bakora. Abakristo b'Abayuda ntibashobora kwihanganira ubusambanyi, kandi abapagani batabubona ko ari ubugesera. Abayuda rero bagumye kuri iri jambo ko gukebwa no kwitondera imigenzo ya Kiyuda bibereye ku banyamahanga, ngo bibe ikimenyetso ko bahindutse bivuye ku mutima kandi ko bubaha Imana ata buryarya. Bizera ko ivyo bizobuza kwinjizwa mw'ishengero abantu batahindutse mu mitima, vyotuma ishengero ritukwa kubera ubusambanyi n'ukutigerera.

Ingingo nyinshi zari muri ico kibazo nyamukuru zasa n'uko zihava zituma inama ija mu ngorane zikomeye. Ariko Mpwemu Yera, mu vy'ukuri, yari yamaze gutorera inyishu ico kibazo, cari ngenderwako ku bwo ubuzima bw'ishengero, mbere cari gikomeye ku buryo ishengero Rukristo ritari kubaho kidatorewe umuti. «Habaye imiburano myinshi, Petero ava hasi, arababwira, ati Bagabo bene Data, murazi yuko kera Imana yantoranije muri mwebwe kugira ngo mu kanwa kanje abe ari ho abanyamahanga bumvaijambo ry'ubutumwa bwiza. Bizere.» Yabajinjibuye kuri ico kibazo mu kubereka ko Mpwemu Yera yamanukiye n'ubushobozi bungana abanyamahanaga batakebwe n'Abayuda bakebwe. Yabibukije ivyo yeretswe, ingene Imana yazanye imbere yiwe igisa n'igihuzu cuzuye ubwoko bwose bw'ibigenza amaguru ane, ikamutegeka ngo niyice arye. Amaze kwanka, yiregura ko atigeze arya ikintu na kimwe gihumanye, maze ikamwishura ngo «Ivyo Imana ihumanuye, reka kuvyita ibizira.» Ivyakozwe n'Intumwa 10:15.

Petero aherako abasobanurira neza ayo majambo, yahawe nko ku gihe kimwe n'itegeko ryo kuja i muhira w'iyo ntwazangabo yatwara abasoda ijana, ngo ayigishe kwizera Kristo. Ubwo butumwa bwerekana ko Imana itarobanura abantu ku butoni, ahubwo yakiriye kandi yemeye abantu bose bayubaha. Petero yababwiye ingene yatangaye abonye, ariko arabwira ukuri abari bakoraniye kwa Koruneliyo, Mpwemu Yera aje kuri abo bantu bamwumviriza, baba abanyamahanga canke Abayuda. Wa muco wakayanganira abakebwe b'Abayuda, ni nawo wakayanganiye mu maso h'abanyamahanga batakebwe. Ivyo vyari bigendereye kugabisha Petero ngo ntarabe umuntu uwo ari we wese nk'uwuri musi y'abandi, kuko amaraso ya Kristo ashobora kwoza ubuhumane bwose. Imbere [101] y'aho, Petero yari yasobanuriye bene data ivyo guhinduka kwa Koruneliyo na bagenzi biwe, n'ubumwe yagiranye nabo. Ubwo yababwira ico gihe ingene Mpwemu Yera yamanutse ku banyamahanga, avuga ati, «None ko Imana yabahaye ingabire imwe n'iyo natwe twahawe harnwe twizera Yesu Kristo, jewe ndi iki gishobora gutangira Imana ?» Ivyakozwe n'Intumwa 11:17. Ubu rero n'inkomezi nka za zindi nyene avuga ati: «Imana izi imitima, yarabashingiye intahe, hamwe yabaha Mpwemu Yera, nk'uko yamuduhaye natwe; ntiyashiraho itandukaniro hagati yacu na bo, yogesheje imitima yabo ukwizera, None rero ni igiki gitumye mugerageza Imana, mwikoreza

abigishwa imitwaro ba sogokuruza batashoboye kwikorera canke twebwe ?» Uyu mutwaro nti vyari ivyagezwe cumi, nk'uko bamwe bavuga ko batakibibohewe ko; Petero yavuga ng'aha ivyagezwe vy'imihango vyagizwe ubusa bigakurwaho n'umusaraba wa Kristo.

Amajambo ya Petero yatumye abari ngaho bashobora kwumviriza Paulo na Barunaba bihanganye, igihe bavuga ivyabashikiye bariko barigisha abapagani. «Maze ishengero ryose riracereza, bumviriza Barunaba na Paulo babiganira ibimenyetso n'ibitangaza vyose Imana yabahaye gukora mu banyamahanga.»Yakobo nawe nyene yashinze intahe yiwe ashimitse, avuga ko wari umugambi w'Imana ku banyamahanga guhabwa amahirwe n'imigisha yari yahawe Abayuda. Mpwemu Yera yabonye ko ari vyiza kudahambirira ivyagezwe vy'imihango y'ihema ryera ku bapagani bakiriye Kristo, kandi iciyumviro c'intumwa kuri ico kibazo cari iciyumviro ca Mpwemu w'Imana. Yakobo ni we yari arongoye iyo nama, kandi ingingo yiwe ya nyuma yari «Nuko rero inama yanje ni uko tureka kugora abo mu banyamahanga bahindukirira Imana.»

Ivyo vyarangije ibihari. Ibi ni vyo bivuguruza inyigisho y'ishengero Katolika rya Roma, zivuga ko Petero yari umutwe w'ishengero. Abo bantu, nk'abapapa, bavuze ko ari basubiriye Petero, nta rufatiro rwo mu Vyanditswe Vyera bafise rwo kubashigikira. Nta kintu na kimwe mu buzima bwa Petero cemeza ko yashizwe hejuru ya bene Data nk'icegera c'Isumbavyose. Iyo aba bavugwa ko ari abasubirizi ba Petero bakurikiza akarorero kiwe, bari kwama banyurwa no kwishira na ntaryo ku rugero rumwe na bene Data. Muri aka karorero bigaragara ko Yakobo yari yatowe gutangaza ingingo yashitsweko muri iyo nama. Ni itangazo ryiwe ryavuze ko ivyagezwe vy'imihango, na cane cane icagezwe co gukebwa, bidategerezwa guhambiririrwa ku bapagani, canke ngo basabwe kubikora. Yakobo yarondera gutahuza bene Data ko mu guhindukirira Imana, abanyamahanga bari bagize ihinduka rikomeye mu buzima bwabo, kandi ko bategerezwa kwiyubara ngo ntiba-
[102] bateshe umutwe ku bibazo vyo gukekeranya kandi bidafise akamaro kanini, vyotuma bacika intege mu gukurikira Kristo. Ariko, abapagani bahindukiriye Imana baategerezwa guheba imigenzo iteye kubiri n'inyigisho Rukristo. Nuko rero intumwa n'abakuru bemeranya kumenyesha abanyamahanga mw'ikete ko bokwirinda kurya ibiterekerewe ibigirwamana, ubusambanyi, ibikoko vyanizwe,

n'amaraso. Bategerezwa kandi kwemezwa ko abo bantu bari bavuze ko gukebwa ari itegeko batari batumwe n'intumwa.

Paulo na Barunaba berekanywe nk'abantu bari bahatswe agatwe kabo ku bwo ubutumwa bw'Umwami. Yuda na Sila barungikanywe n'izo ntumwa kubwira abapagani n'akanwa kabo ingingo y'iyo nama: «Mpwemu Yera bimubereye vyiza, natwe ni uko, kutabikoreza uwundi mutwaro urenze ibi bikwiye; mureke kurya ivyaterekesherejwe ibigirwamana, n'amaraso, n'ibinizwe, mureke no gusambana; ivyo ni mwavyirinda, muzomera neza.» Abo basuku b'Imana bane barungitswe i Antiyokiya bafise urwandiko n'ubutumwa vyategerezwa kurangiza ibihari; kuko ryari ijwi ry'ububasha bwo hejuru buri hano kw'isi. Inama yatoye inyishu y'iyo ngorane yari igizwe n'intumwa n'abigisha bari babaye intwari mu gushinga amashengero y'abapagam n'Abayuda, hamwe n'intumwa zivuye mu turere dutandukanye. Abakuru bavuye i Yerusalemu n'intumwa zivuye i Antiyokiya zari aho, kandi menshi mu mashengero akomeye yari yaserukiwe. Iyo nama yakoze yisimze ubwenge bumurikiwe, hamwe n'agateka k'ishengero ryashinzwe ku bwo ubugombe bw'Imana. Icavuye mu vyiyumviro vyabo, ni uko bose babonye ko Imana na yo yishuye ico kibazo mu gusuka Mpwemu Yera ku banyamahanga; kandi batahuye ko vyari bibereye ko bokurikiza uburongozi bwa Mpwemu.

Ishengero ryose ry'Abakristo ntiryahamagawe ngo ryemeze ingingo yafashwe ku bwo ico kibazo. «Intumwa n'abakuru,» abantu b'ijunja n'ivyiyumviro birashe, barateguye bongera basohora iryo tegeko, ryemewe muri rusangi n'amashengero yose Rukristo. Ariko si bose bashimishijwe n'iyo ngingo. Hari igice ca bene Data barondera kwishira hejuru kandi biyemera, banse iyo ngingo. Abo bantu biyemeje gukora igikorwa nk'uko bishakiye. Batanguye kwidodomba cane no gutora abandi amakosa, bashaka gushiraho imigambi misha, no kurondera gusenyura igikorwa c'abantu Imana yarobanuriye kwigisha ubutumwa bwiza. Uhereye kera ishengero ryamye rihura n'intambamyi nk'izo, kandi rizokomeza guhura nazo gushika ku muhero w'isi. Yerusalemu cari igisagara gikuru c'Abayuda, kandi niho amacakubiri n'ukurobanurana vyarangwa. Abakristo b'Abayuda bagumanye ivyiyumviro vy'urusengero rw'i Yerusalemu bemereye ubwenge bwabo gusubira kwiyumvira imigisha n'amahirwe adasanzwe vyari vyahawe ihanga ry'Abayuda.

Babonye ishengero Rukristo ryitandukanije n'imihango hamwe
[103] n'imigenzo ya Kiyuda, maze bakabona ko ubweranda budasanzwe bibaza ko buri mu migenzo ya Kiyuda bugiye kwibagiranwa bidatevye kubera uko kwizera gusha, benshi bashavuriye Paulo ngo ni we ahanini yatumye haba iryo hinduka. N'abigishwa ntibari biteguye bose kwemera ingingo y'iyo nama. Bamwe bagira umwete mu kwitwararika ivyagezwe vy'imihango, maze babona Paulo nabi, kuko biyumvira ko atitayeho ibijanye n'amategeko y'imigenzo ya Kiyuda. Ingingo z'iyo nama ya bose zazanye icizere mu bizera bavuye mu banyamahanga, kandi vyatumye igikorwa c'Imana kiroranirwa. Muri Antiyokiya ishengero ryashimishijwe no kubona Vuda na Sila, za ntumwa zidasanzwe zari zigarukanye n'intumwa zivuye mu nama y'i Yerusalemu.

Na Yuda na Sila, kuko nabo bari abavugishwa n'Imana, bahura bene Data mu majambo menshi, barabaremesha.» Abo bantu bubaha Imana baratevye gato muri Antiyokiya. «Paulo na Barunaba baguma muri Antiyokiya bigisha abantu, bababwira ijambo ry'Umwami Yesu, bafatanije n'abandi benshi.»

Igihe nyuma y'aho Petero yagendera Antiyokiya, yatumye abantu benshi bamwizera ku bwo inyifato yiwe y'ubwenge imbere y'abizera bavuye mu bapagani. Mu gihe gito yarakurikiye umuco wavuye mw'ijuru. Yaratsinze kandi ingeso ya kamere yiwe yo kwinubana, nk'iyo kudasangira n'abizera bakomotse mu bapagani. Ariko Abayuda batwarira hejuru mu guharanira ivyagezwe vy'imihango y'urusengero bashitse bavuye i Yerusalemu, Petero yaratirimutse arahindura inyifato yiwe imbere y'abizera bakomotse mu bapagani. Kandi n'abandi Bayuda «bahumbana nawe, bitayeko na Barunaba atwarwa n'ubwo buhumvyi bwabo.» Izi ntege nke zagaragaye ku bantu nk'abo bubahwa kandi bagakundwa nk'abarongozi, zababaje cane imitima y'abizera baje bava mu bapagani. Ishengero ryahatswe kwicamwo ibice. Ariko Paulo we, yabonye akaga k'iryo kosa rikorewe ishengero bivuye ku nyifato ya Petero yo kuba barimwotubiri, amukosorera imbere ya bose ku bwo iyo nyifato y'uburyarya. Imbere y'ishengero, Paulo abaza Petero ati, «ko wewe uri Umuyuda, ugobera ute abanyamahanga kuba nk'Abayuda?» Ab'i Galatiya 2:13,14.

Petero yabonye ikosa yari yaguyemwo, yihutira uko ashoboye kose gukosora ikibi cari camuvuyemwo. Imana yo izi iherezo

uhereye mw'itanguriro, yararetse Petero ngo yerekane intege nke z'ingeso yiwe kugira ngo iyo ntumwa yaciye mu kigeragezo ibone muri yo ko ata kintu na kimwe ifise co kwiratira. Naho yoba ari umuntu mwiza cane, igihe arekewe kuba wenyene, azokwihenda mu ngingo ziwe. Imana kandi yabonye ko mu gihe kizoza hariho abantu bazohendwa, nk'uko biri ku bigira abasubirizi biwe, bakiha ububasha bugenewe Imana yonyene. Ibi vyanditswe vyerekeye ubunyantege nke bw'iyo ntumwa, vyari bigendereye kuzoguma ari [104]
icemezo ko Petero ashobora gukora amakosa nk'abandi bantu bose, kandi ko atari hejuru y'izindi ntumwa.

Iyi nkuru yo kuva ku mategeko igendereye kugabisha ku mugaragaro abantu bashizwe mu kibanza c'ubwizigirwa mu gikorwa c'Imana, ko badakwiye kuva mu nzira y'ubutungane, ahubwo ko bakwiye kwihambirira kw'itegeko. Uko umuntu ahabwa ibikorwa bihambaye, ni ko n'uburyo bwo gutegeka no kugenzura abandi bwiyongera, ni ko n'ubushobozi bwo kwonona bwiyongera, iyo adakurikije neza inzira y'Umwami Yesu, no gukora yisunze ingingo zashitsweko mu nama yakoranije abantu bose. Inyuma y'amakosa ya Petero, amaze kugwa no kwikosora, igikorwa ciwe gihambaye, ubumwe bwiwe na Kristo, kumenya ingene Umukiza agendera ku mategeko, amaze kuronka izo nyigisho zose, ingabire n'ubumenyi n'ijunja yagize mu kwamamaza no kwigisha ijambo ry'Imana- mbega ntibitangaje kubona yaratirimutse akava ku mategeko y'inkuru nziza ku bwo gutinya umuntu, canke ku bwo kurondera kwikundwakaza? Mbega ntibitangaje kubona yarahungabanye ku nyifato yiwe yo gukurikiza ukuri? Icompa Imana ikereka umuntu wese intege nke ziwe, ikamwereka ko adashoboye kurongora ubwato bwiwe ngo abushikane amahoro ku kivuko.

Mu gikorwa ciwe, Paulo vyamusavye kenshi guhagarara wenyene. Yigishijwe cane cane n'Imana kandi ntiyigeze yemera kuva kw'itegeko. Rimwe na rimwe umutwaro wari uremereye, ariko Paulo yahagarariye ukuri ashikamye. Yatahuye ko ishengero ridategerezwa gutegekwa n'ubushobozi bw'umwana w'umuntu. Imigenzo n'amategeko y'abantu ntibitegerezwa gufata ikibanza c'ukuri kwahishuwe. Iterambere ry'ubutumwa bwiza ntiritegerezwa kuburabuzwa n'ubuhumvyi no kwihitiramwo vy'abantu, n'aho boba bafise igikorwa gihambaye gute mw'ishengero. Paulo n'inkomezi ziwe zose yari yaritanze atiziganije ku bwo igikorwa c'Imana. Ukuri

kw'ubutumwa bwiza yari yakuronse kuvuye mw'ijuru ata muntu buciyeko, kandi mu gikorwa yagumanye ubumwe n'intumwa zo mw'ijuru. Yari yigishijwe n'Imana ku vyerekeye kudahambirira ku Bakristo bavuye mu bapagani imitwaro idakenewe; ni co gituma, igihe abizera bakomeje gukurikira imigenzo ya Kiyuda binjiza mw'ishengero ry'i Antiyokiya ikibazo co gukebwa, Paulo yatahuye iciyumviro ca Mpwemu w'Imana ku bijanye n'ico kibazo, maze afata ingingo itayegayega yazaniye amashengero umwidegemvyo ku vyerekeye imigenzo n'imihango ya Kiyuda. N'ubwo Paulo yari yiyigishirijwe n'Imana, nfiyagize ingorane zo gufata ingingo akurikije ubwenge bwiwe. Igihe yaba akirindiriye uburongozi bwT-mana, yaremera ububasha buvuye mu nama y'abizera nk'ishengero. Yarakenera impanuro, kandi igihe habonetse ibibazo bikomeye, vyaramushimisha kubizana imbere y'ishengero, no gufatanya na
[105] bene Data mu gusenga Imana ngo ibahe ubwenge bwo gufata ingingo zibereye. Mbere yaravuze ati «Impwemu z'abavugishwa n'Imana ziganzwa n'abavugishwa n'Imana: Kuko Imana atari Imana y'umuvurungano, ariko ni iyo amahoro.» 1 Ab'i Korinto 14:32,33. Yifatanije na Petero kwigisha ko abizera bose bategerezwa «gukorerana» 1 Petero 5:5.

## Ikigabane ca 20: Gushira Hejuru Umusaraba

*Iki kigabane gishimikiye kti Vyakozuie n'Intumwa 15:36-41; 16:1-6.*

Hashize imisi bakorera i Antiyokiya, Paulo asaba mugenziwe ko bofata urundi rugendo bakaja kuvuga ubutumwa. Abwira Barunaba ati, «ingo dusubire ha handi tugendere bene Data mu gisagara cose aho twavuze ijambo ry'Umwami Yesu, tumenye uko bameze.»Paulo na Barunaba bompi baritwararika n'umutima w'urukundo abari baherutse kwakira ubutumwa bwiza ku bwo igikorwa cabo, kandi barifuza kwongera kubabona. Paulo ntiyigera atakaza uwo mwitwarariko. N'igihe yaba ari kure mu murima w'Imana kure y'aho yahoze akorera, yakomeza kugumya mu mutima uwo mutwaro wo guhimiriza abo bizera kuguma ari abizigirwa, «kuba abera tugushikishe kwubaha Imana.» 2 Ab'i Korinto 7:1. Buri gihe yagerageza kubafasha kuba Abakristo batazera inze, bakomeye mu kwizera, bafise umwete mwinshi, kandi b'abanyakuri mu kwihebera Imana n'igikorwa co guteza imbere ubwami bwayo. Barunaba yari yiteguye kujana na Paulo, ariko kandi yifuza ko bojana na Mariko, yari yongeye gufata ingingo yo kwihebera kuvuga ubutumwa bwiza. Ivyo Paulo ntiyavyemeye. «Yiyumviriye ko bitabereye kujana» n'uwabataye mu rugendo baja kuvuga ubutumwa, mu gihe bari bamukeye. Ntiyari yiteguye gutahura intege nke Mariko yagize mu kubaheba mu gikorwa ku bwo kwikingira no kwinezerererwa i muhira. Yavuze ko umuntu nk'uwo atarinda imiruho atabereye igikorwa gisaba kwihangana, kwiyanka, kuba intwari, kwitanga, kugira utwigoro, igihe bikenewe, mbere n'ubuzima bukaba bwonahasigara. Havyutse imitongano gushika aho Paulo na Barunaba batandukanye, Barunaba ntiyava ku rizima, maze ajana na Mariko. «Nuko Barunaba ajana na Mariko, avudukayo ari mu bwato, afata i Kupuro; Paulo na we atoranya Sila, avayo, bene Data bamaze kumuragiza ubuntu bw'Imana.»

Nuko Paulo na Sila baca i Siriya n'i Kilikiya baremesha ishengero, bashika i Derube n'i Lusitira mu ntara y'i Lukawoniya.

Aho i Lusitira ni ho Paulo yari yaratewe amabuye, ariko raba, n'ubu, asubiye aho hantu yahatswe gusiga agatwe. Yifuza cane kubona ingene abari barakiriye ubutumwa bwiza ku bwo ibikorwa vyiwe bihanganiye ikigeragezo c'agahamo. Ntiyacitse intege, kuko yaˆanze
[106] abizera b'i Lusitira bagumye bashikamye hagati y'agahamo gakomeye cane.Paulo yongeye guhura na Timoteyo, wa wundi yari yiboneye imibabaro yiwe mu mpera z'urugendo rwiwe i Lusitira kandi bikamukora ku mutima ku buryo mu nyuma yahavuye atahura ko vyari ngombwa ngo yitangire igikorwa c'ubutumwa bwiza. Umutima wiwe wahuye n'uwa Paulo, kandi yifuza gusabikanya ibikorwa n'iyo ntumwa mu kumufasha igihe cose akaryo kazoboneka.

Sila, uwari afatanije igikorwa na Paulo, yari umukozi abimenyereye, afise ingabire ya mpwemu y'ubuhanuzi; ariko igikorwa cari gikeneye kumenyereza abandi bakozi. Paulo yabonye muri Tunoteyo umuntu yishimiye ubweranda bw'igikorwa c'umuvugabutumwa; adadnya imibabaro n'agahamo; kandi yemera kwigishwa. Ariko iyo ntumwa ntiyigerejeko ngo yishireko umutwaro wo kwigisha Timoteyo, umusore ataramenyera, igikorwa c'ivugabutumwa atabanje kugenzura no kunyurwa n'ingeso ziwe na kahise kiwe. Se wa Timoteyo yari Umugiriki, nyina na we akaba Umuyudakazi. Uhereye akiri muto yari azi Ivyanditswe Vyera. Mu rugo i wabo yahabonye ukwubaha Imana gukomeye, kandi kurimwo ubwenge. Ukwizera kwa nyina na inakuru mu Vyanditswe Vyera vyaguma bimwibutsa imihezagiro itangwa n'ugukora ubugombe bw'Imana. Ijambo ry'Imana ryari inyobozo abo bagore beranda bari bareresheje Timoteyo. Ubushobozi bwa Mpwemu bw'ivyigwa yari yakuye kuri abo bagore bwari bwaramuzigamye aguma atagira agasembwa mu mvugo, kandi atandujwe n'ibibi vyari bimuzungurutse. Abo bigisha rero b'i muhira bari bafatanije n'Imana mu kumutegura kwikorera imitwaro.

Paulo yabonye ko Timoteyo yari intungane, umwizigirwa n'umunyakuri, maze amutora ngo bafashanye mu bikorwa no mu ngendo. Abari bigishije Timoteyo mu bwana bwiwe barashimishijwe no kubona umwana bareze yifatanije n'iyo ntumwa rurangiranwa. Timoteyo yari akiri muto igihe Imana yamutorera kuba umwigisha, ariko ingingo yagenderako zari zishimangiwe n'indero yari yaratojwe imbere y'aho, ku buryo yari abereye ikibanza co kuba umufasha wa Paulo. Kandi naho yari muto, yaranguye am-

abanga yiwe n'ubwitonzi rukristo. Ku bwo kwikingira, Paulo yagize ubwenge, ahanura Timoteyo ko yokebwa.-atari uko Imana yabisaba, ahubwo kugira bakure mu mutwe w'Abayuda icitwazo cari kubuza Timoteyo kurangura igikorwa ciwe co kuvuga ubutumwa. Mu gikorwa ciwe, Paulo vyamusaba kugendagenda ava mu gisagara aja mu kindi, mu turere twinshi, kandi kenshi yararonka akaryo ko kwamamaza Kristo mu masinagogi y'Abayuda, mbere no mu bindi bibanza abantu bakoraniramwo. Iyo bimenyekana ko uwo bafatanije igikorwa atakebwe, igikorwa ciwe cari kwankirizwa ku bwo ivyiyumviro vyo kurobanura n'amacakubiri vy'Abayuda. Ahantu hose iyo ntumwa yahura n'abansi n'agahamo gakomeye. Yifuza kuzanira bene se b'Abayuda co kimwe n'Abapagani ubu- [107]
menyi bw'ubutumwa bwiza, ni co gituma rero, aho bidateye kubiri n'ukwizera, yagerageza gukuraho icitwazo co kumurwanya. Ariko, n'ubwo yemera ivyo kubera amacakubiri y'Abayuda, yizera kandi akigisha ko gukebwa canke kudakebwa ata co bimaze, ariko ko inkuru nziza ya Kristo ari yo iruta vyose.

Paulo yarakunda Timoteyo, «umwana wiwe nyakuri mu kwizera.» 1 Timoteyo 1:2. Iyo ntumwa karuhariwe yarasohokana uwo mwigisha w'umuyabaga, akamubaza ku bijanye n'inkuru z'Ivyanditswe Vyera, kandi uko bagendagenda mu bibanza bitandukanye, ni ko yamwigisha yitonze uburyo bwo gukora igikorwa kiroranye. Bompi, Paulo na Sila, mu migenderanire yabo na Timoteyo, bagerageza gushimangira iciyumviro cari mu bwenge bwiwe, ko kuvuga ubutumwa ari igikorwa ceranda. Mu gikorwa ciwe, Timoteyo yama asaba Paulo impanuro n'inama. Ntiyahababuka, ahubwo yaritonda, akiyumvira, yibaza kuri buri ntambwe yatera ati, Iyi koko ni inzira y'Umwami? Mpwemu Yera yabonye muri we umuntu yashobora kunonosorwa akaba inyubakwa Imana yiberamwo. Uko ivyigwa vya Bibiliya vyigwa mu buzima bwa buri musi, bigira ku ngeso ihinduka rikomeye rizoramba ibihe vyose. Ibi vyigwa, Timoteyo yaravyiga kandi akabigendera. Nta mpano zihambaye zidasanzwe yari afise, ariko igikorwa iwe cabaye ngirakamaro kuko yakoresha mu gikorwa c'Umwami ubushobozi butangwa n'Imana. Ubumenyi bwiwe bw'idini yaronkeye mu gikorwa bwamushize hejuru y'abandi bizera kandi bituma bamwubaha.

Abakora igikorwa co gukiza imitima bategerezwa gushika ku kumenya Imana ku buryo bwimbitse, bwuzuye, butomoye cane,

burengeye ubwo umuntu yoshikako ku bwo utwigoro twiwe. Bategerezwa gushira inkomezi zabo zose mu gikorwa c'Umwami wabo. Biyemeza umuhamagaro uhambaye kandi wera, kandi niba bungutse imitima mu gikorwa cabo, bategerezwa kwumira ku Mana, buri musi bakakira ubuntu n'ubushobozi bwo kw'isoko y'imihezagiro. «Kuko ubuntu bw'Imana bwaserutse, buzanira abantu bose agakiza, butwigisha kwikunkumura ukutubaha Imana n'ukwifuza ivy'isi, bukatwigisha kwama tudahugumba, tugororoka, twubaha Imana, mu gihe ca none, twitega ivyizigiro vy'amahirwe no kuzoseruka kw'ubwiza bwa Yesu Kristo, ni we Mana yacu ihambaye n'Umukiza, yatwiguze kugira ngo aducungure, adukureko ivyo twagabitanije, vyose, kandi yihumanurire ubwoko ngo babe icibare ciwe, barwane ishaka ry'ibikorwa vyiza.» Tito 2:11-14.

Imbere yo kwunguruza mu karere gashasha, Paulo na bagenziwe, bagendeye amashengero bari barashinze i Pisidiya no mu micungararo yaho. «Bariko baraca mu bisagara, bagenda bababwira ivyo intumwa n'abakuru b'i Yerusalemu bashinze, ngo bavyitondere. Nuko amashengero akomerezwa mu kwizera, agenda yunguka ibitigiri yose.»

[108] Intumwa Paulo yumva ifise umutwaro ku bwo abantu bahindukiriye Imana bivuye ku bikorwa vyiwe. Ikiruta vyose, yifuza ko baba abizigirwa, «kugira ngo mbone ico nzokwirata ku musi wa Kristo,» ati «yuko ntirukiye ubusa kandi ntaruhijwe n'ubusa.» Ab'i Fihpi 2:16. Yarahinda umushitsi ku bwo ingaruka y'igikorwa ciwe. Yumva ko n'agakiza kiwe kogeramirwa igihe atoshitsa igikorwa ciwe, n'ishengero ntirifatanye nawe mu gikorwa co gukiza imitima. Yari azi ko kuvuga ijambo ry'Imana bidahagije kugira ngo abizera baronke inyigisho zobafasha gushikama mw'ijambo ry'ubugingo. Yari azi ko ari ibwirizwa ku rindi, ibwirizwa ku rindi, n'umurongo ku wundi, umurongo ku wundi, hamwe tumwe, ahandi utundi, ariho bashobora gutera imbere mu gikorwa ca Kristo.

Ni itegeko riraba abantu bose ko igihe umuntu yanse gukoresha inkomezi Imana yamuhaye, izo nkomezi zihonobera, zigahona. Ukuri umuntu atagendeye, kudahawe abandi, guca gutakaza inkomezi ntangabugingo, ububasha bwakwo bwo gukiza. Aha ni ho hari ubwoba bw'iyo ntumwa, ko kumbure itoshikanira Kristo umuntu wese atagira agasembwa. Ivyizigiro vya Paulo vyo kuja mw'ijuru vyaragabanuka yihweje ikosa ryiwe iryo ari ryo ryose ry-

ovana no guha ishengero akarorero k'abantu aho kubaha akarorero k'Imana. Ubumenyi bwiwe, kuba imvuzi kwiwe, ibitangaza vyiwe, ivyo yeretswe vy'ibihe bidashira igihe yajanwa mw'ijuru rya gatatu-ivyo vyose vyoba impfagusa, igihe kubwo kutaba umwizigirwa mu gikorwa ciwe, abo yashikirije ubutumwa bobura ubuntu bw'Imana. Ku bwo ivyo rero, mu majambo no munyandiko, yinginga abakiriye Kristo kugira ubuzima buzobashoboza kuba «abatagira umugayo canke akarohe, babe abana batagira agasembwa, hagati y'abo iki gihe bagoramye b'ibidambidambi,... nk'amatara mw'isi, berekana ijambo ry'ubugingo.» Ab' i Filipi 2:15,16. Umuvugabutumwa w'ukuri wese yumva umutwaro uremereye ku bwo iterambere mu vya Mpwemu ry'abizera ajejwe, icifuzo c'uko bazoba abakozi hamwe n'Imana. Atahura ko amahirwe y'ishengero ahagaze ku gukorana ubwizigirwa igikorwa yahawe n'Imana. Yitwararika adahumeka gusaba abizera kwifuza kuzanira imitima Kristo, bibuka ko umuntu wese yiyongereye kw'ishengero ari umukozi musha wo gushira abandi umugambi w'agakiza.

Bamaze kugendera amashengero muri Pisidiya no mu turere twaho, Paulo na Sila, hamwe na Timoteyo, bafashe «i Furugiya no mu karere ka Galatiya,» aho bamamaje n'ubushobozi bwinshi ubutumwa bwiza bw'agakiza. Abagalatiya basenga ibigirwamana; ariko, intumwa zimaze kubabwira ubutumwa bwiza, baranezerewe ubutumwa bubasezeranira kubohorwa icaha. Paulo na bagenziwe batangaje inyigisho y'ubugororotsi butangwa no kwizera ikimazi c'impongano ca Kristo. Berekanye Kristo nk'uwabonye [109]
ko ikiremwa muntu kitagira ivyizigiro, aza gucungura abagabo n'abagore mu kubaho ubuzima bwo kugamburukira ivyagezwe vy'Imana, no gutanga indishi y'ubugarariji. Kandi, benshi batari bazi Imana y'ukuri, ku bwo umusaraba batanguye gutahura urukundo rwa Data rutagira urugero. Nuko rero Abagalatiya bigishijwe ukuri kwerekeye «Imana Data» n' «Umwami Yesu Kristo, yitangiye ivyaha vyacu, ngo aturokore muri iki gihe kibi ca none, nk'uko Imana yacu yagomvye, ni yo Data wa twese.» «Ku bwo kwumva gufatanije n'ukwizera» baronse Mpwemu w'Imana, maze bacika «abana b'Imana ku bwo kwizera Kristo.» Ab'i Galatiya 1:3,4; 3:2, 26.

Uburyo Paulo yifashe ari mu Banyagalatiya bwatumye ashobora kuvuga mu nyuma ati, «Ndabinginze, mumere nkanje.» Ab'i

Galatiya 4:12. Iminwa yiwe yari yarakozweko n'ikara rizima rivuye ku gicaniro, kandi yarashoboye kurengera ubumuga bw'umubiri no kwerekana ko Yesu wenyene ari we vyizigiro vy'Umunyavyaha. Abamwumva batahuye ko yari yarabanye na Yesu. Kuko yari yuzuye inkomezi zo mw'ijuru, yashobora kugereranya ibintu vya Mpwemu n'ibindi, kandi agasenyura ububasha bwa Satani. Imitima yarameneka igihe yerekana urukundo rw'Imana, nk'uko ruhishuririrwa mu kimazi c'Umwana wayo w'ikinege, kandi yatumye benshi babaza bati, Nokora iki ngo ndonke ubugingo budashira? Ubu buryo bwo kwamamaza ubutumwa bwaranga ibikorwa vy'iyo ntumwa igihe yakorera mu Bapagani. Na ntaryo yaguma abereka umusaraba w'i Kaluvari. Mu myaka ya nyuma y'ubuzima bwiwe, yavuze ati, «Ntitwigisha abantu ivyacu,» «ariko tubigisha ivya Kristo Yesu ari we Mwami, natwe yuko turi abasuku banyu ku bwa Yesu. Imana, imwe yavuze ngo umuco wake, uvuye mu mwiza, ni yo yakiye mu mitima yacu, kwerekana umuco, ni wo kumenya ubwiza bw'Imana buri mu nyonga ha Yesu Kristo.» 2 Ab'i Korinto 4:5, 6. Izo ntumwa zatoranijwe zashiriye isi iriko irahona inkuru nziza y'agakiza mu misi ya mbere y'ishengero rya Kristo, ntizigeze zemerera iciyumviro co kwishira hejuru kwonona igikorwa cazo co kwerekana Kristo, kandi Kristo yabambwe. Nti zifuje ubutegetsi canke icubahiro. Banyegeje inarije mu Mukiza, bashira hejuru umugambi w'agakiza. Kristo, umwe ari wa wundi ejo, uyu musi, n'ibihe bidashira, ni we yari umwitwarariko w'inyigisho yabo.

Iyaba uyu musi abigisha ijambo ry'Imana boshize hejuru umusaraba, mbere hejuru cane, igikorwa cabo coteye imbere cane kuruta uko kiri. Abanyavyaha bashoboye gushikanwa ku rugero rwo kwihatira kurangamiza na rimwe ku musaraba, ni bashobora kubona neza Umukiza yabambwe, bazotahura uburebure bw'impuhwe z'Imana n'ububi bw'icaha. Urupfu rwa Kristo rugaragaza urukundo rutangaje Imana ikunda umuntu. Ni isezerano ry'agakiza kacu. Gukura umusaraba ku Mukristo, vyosa
[110] n'uguhanagura izuba mw'ijuru. Umusaraba utuzana hafi y'Imana, ukatunywanisha na Yo. Mu mpuhwe z'urukundo rw'umuvyeyi, Yehova yitegereza ububabare Umwana wiwe yikoreye ngo akize abantu urupfu rw'ibihe vyose, maze akatwakira mu wo akunda cane.

Hatabayeho umusaraba, umuntu ntiyogiranye ubumwe na Data. Kuri wo ni ho hari ivyizigiro vyacu vyose. Kuri wo ni ho umuco

w'Umukiza ukayanganiuiira, kandi iyo umunyavyaha arangamije ku wamupfiriye, ashobora kugira umunezero wuzuye, kuko ivyaha vyiwe vyahariwe. Apfukamye ku musaraba mu kwizera, ashika mu kibanza cirengeye cane hejuru umuntu yoshobora gushika. Biciye ku musaraba dutahura ko Data wo mw'ijuru adukunda urukundo rutagira akagero. Twotangazwa n'uko Paulo yashize hejuru avuga ngo «Imana ntikavyumve, ko nokwirata ikindi, atari umusaraba w'Umwami wacu Yesu Kristo.» Ab'i Galatiya 6:14. Ni amahirwa yacu kandi kwirata umusaraba, amahirwe yacu kwitangira burundu uwitanze ku bwacu. Maze rero, dufise umuco usesekara uvuye i Kaluvari ukayanganira mu maso hacu, dushobora kugenda guhishurira uwo muco abari mu mwiza.

## Ikigabane ca 21: Mu Ntara Zo Hirya

*Iki kigabaue Gishimikiye ku vyakozwe n'lntumwa 16:7- 40*

Igihe cari kigeze ngo ubutumwa bwiza buvugwe hirya y'akarere ka Asiya ya hafi. Inzira yariko iraboneka ngo Paulo na bagenziwe bajabuke mu Burayi. I Tirowa, ku nkengera yTbahari Mediterane, «maze Paulo mw'ijoro arota inzozi, abona umugabo w'i Makedoniya ahagaze amwinginga, ati Jabuka uze i Makedoniya udutabare.»Umuhamagaro warihuta, ntiwari ukeneye ko atebagana. «Amaze kurota izo nzozi,» Luka, uwari yaherekeje Paulo na Sila na Timoteyo mu rugendo bajabuka Uburayi ,avuga ati: «tuca turondera ingene tuja i Makedoniya, kuko tumenye yuko Imana iduhamagariye kubabwira ubutumwa bwiza. Nuko tuvuduka i Tirowa mu bwato, turaramiriza tuja i Samotirake, bukeye bw'aho dushika i Neyapoli, tuvuyeyo dushika i Fihpi, igisagara c'i Makedoniya gikuru muri iyo ntara, cubatswe n'Abaroma.» «Ku musi w'Isabato,» niko Luka akomeza kuvuga, «turengana irembo ry'igisagara, tuja ku ruzi, dukeka ko hobayo ahahoTa hasengerwa; turicara, tuyaga n'abagore bahakoraniye. Umugore umwe yitwa Ludiya, umudandaza w'impuzu z'inyambarabami, wo mu gisagara ciwa Tuwatira, yubaha Imana, aratwumviriza : Umwami Yesu amwugurura umutima.» Ludiya yakiriye ukuri anezerewe. We n'abo mu nzu yiwe barahindukiriye Imana kandi barabatizwa, kandi yinginga iyo ntumwa ngo isembere iwe.

Ubwo intumwa z'umusaraba zakomeje igikorwa zigisha, umwigeme yari afise dayimoni iragura yarabakurikiye asemer-
[111] era ngo, «aba bantu ni abasavyi b'Imana isumba vyose, kandi barababarira inzira y'agakiza. Amara imisi myinshi agenza atyo.» Uwo mwigeme yari intumwa idasanzwe ya Satani kandi yari yaratungishije ba shebuja ku bwo iyo ndagu. Ibikorwa vyiwe vyari vyafashije gushigikira gusenga ibigirwamana. Satani yari azi ko ubwanu bwiwe bwatewe, maze afata iyo nzira ngo arwanye igikorwa c'Imana, yizigiye ko avanga ubuhendanyi bwiwe n'ukuri kwigishwa

n'abo bariko baramamaza ubutumwa bwiza. Amajambo y'uwo mwigeme yavuga abwira abantu yari intambamyi ku kuri, yasamaza abantu ngo ntibakurikire inyigisho z'intumwa, maze agatitura ubutumwa bwiza, kandi ku bwo ayo majambo yatumye benshi bizera ko abo bantu bavugishwa na Mpwemu n'ubushobozi bw'Imana bakoreshwa n'impwemu isa n'impwemu y'iyo ntumwa ya Satani.

Mu kiringo gito intumwa zarihanganiye uwo mwansi; hanyuma, asunitswe na Mpwemu Yera, Paulo ategeka iyo dayimoni kuva muri uwo mwigeme. Kuba yaciye aceceka, vyagaragaje ko intumwa zari abakozi b'Imana kandi iyo dayimonia yari yatahuye ko ari abakozi b'Imana koko, kandi yarubashe itegeko ryabo. Amaze kubohorwa iyo dayunoni, kandi akongera gutora ubwenge nyakuri, uwo mwigeme yaciye ahitamwo kuba umwigishwa wa Kristo. Maze ba shebuja babonye ko ico bazigako inyungu kivuyeho, bagira ubwoba. Babonye ko ivyizigiro vyabo vyose vyo kuronka amahera mu ndagu yiwe vyari birangiye kandi ko isoko y'amahera yari igiye gukama bidatevye igihe intumwa zorekurirwa kubandanya igikorwa co kuvuga ubutumwa. N'abandi benshi bashimishwa no kuronka amahera biciye mu buhendanyi bwa Satam, maze, abo nabo ku bwo gutinya ubushobozi bushobora guhagarika igikorwa cabo, bashira hejuru basemerera biyamiriza abasuku b'Imana. Bafata izo ntumwa barazikwega bazijana imbere y'abacamartza babarega: «Aba bantu bahagarika imitima y'abo mu gisagara cacu, kandi ari Abayuda; batuzanira imigenzo tuzira kwemera canke kuyikora, twebwe turi Abaroma.»

Ishengero ribahagurukira icarimwe, abacamanza babakakagurirako impuzu, bategeka ko babakubita. «Bamaze kubakubita inkoni nyinshi, babashira mw'ibohero, babarira umurinzi kubarinda cane . nawe abariwe atyo abashira mu nzu yo hagati, arobeza amaguru yabo mu mpatane z'ibiti.» Intumwa zarababajwe n'ihohoterwa rikomeye ku bwo aho hantu bazisize, ariko ntibavyidogeye. Ahubwo, mu mwiza w'umuzitanya n'ukwigunga kwo mw'ibohero, barashigikiranye mu majambo no mu gusenga kandi baririmba bashimagiza Imana kuko basanzwe babereye gukozwa isoni ku bwa Kristo. Imitima yabo yanezerejwe n'urukundo rukomeye bakunda igikorwa c'Umukiza. Paulo yakubitije agatima mpembero ku gahamo yari yahoze ateza abigishwa ba Kristo, maze anezezwa n'uko amaso yiwe yugurutse akabona, n'umutima wiwe ugatahura

[112] ubushobozi bw’ubuninahazwa bw’ukuri yahora akengera kera. Abandi bafungwa batangajwe n’ukwumva amasengesho n’indirimbo biva mw’ibohero. Bari bamenyereye kwumva akaruru n’intimba, imivumo n’indahiro, birengera agacerere k’ijoro; ariko nta na rimwe bari bwumve amasengesho n’amashimwe biduga biva muri ivyo vyumba vy’umwiza. Abarinzi hamwe n’imbohe baratangaye baribaza abo bantu abo ari bo, bashobora kunezerwa bari mu mbeho, umukanda mu nda, n’ihohoterwa.

Abacamanza bobo bitahiye i muhira birya akara ngo bafashe ingingo ruhasha zo guhumuriza abanyagihugu. Ariko bashitse mu nzira bumvise ibintu bidasanzwe bijanye na kamere bo n’igikorwa c’abo bari baciriye urubanza rwo kubabazwa n’ugutabwa kandi bakabata muri yompi. Bitegereje wa mwigeme yari yabohowe ubushobozi bwa Satani maze batangazwa n’ihinduka riboneka mu maso hiwe no mu nyifato yiwe. Muri ka hise, yari yateje ingorane nyinshi igisagara; none ubu aratekanye kandi afise amahoro. Babonye ko uko biri kose baciriye igihano c’itegeko ry’Abaroma abantu ataco bagirizwa, baricujije maze bafata ingingo ko mu gitondo bazotegeka ko intumwa zibohorwa mu mpisho, zikavanwa mu gisagara, bagakingirwa akaga n’ubwicanyi bw’abanyagihugu.

Ariko n’ubwo abantu bagize agatima k’ubwicanyi no kwihora, canke bakaba abagesera mu kudakora ico bajejwe, Imana yoyo ntiyibagiye kugirira neza abasuku bayo. Ijuru ryose uko ryakabaye ryari ryitayeho abo bantu bariko barababazwa ku bwa Kristo, maze abamarayika barungikwa kugendera iryo bohero. Imirindi yabo yahindishije isi umushitsi. Inzugi karuhariwe ziremereye zariyuguruye; iminyororo n’ivyuma bizungurutse ibikonjo n’amaguru y’izo mbohe biracagagurika; maze umuco ukayangana wuzura iryo bohero. Umurinzi w’ibohero yari yatangajwe n’amasengesho n’indirimbo z’amashimwe vy’izo ntumwa ziboshwe. Igihe yinjira yari yabonye ibikomere vy’izo ntumwa bijejeta amaraso, kandi we nyene ubwiwe yari yarobeje amaguru yabo mu mpatane y’ibiti. Yari arindiriye kwumva baboroga kandi bisiba, ariko mu kibanza c’ivyo, yari yumvise indirimbo z’amashimwe. Uyo murinzi yari yasinziriye yumva ayo majwi, yinjira mw’itiro yakuwemwo n’ukunyiganyiga n’ukudegedwa kw’impome z’ibohero. Ashira akaruru hejuru, abona inzugi zose zuguruye, maze atinya yibaza ko ba bafungwa batorotse. Yibutse ingene baraye bamwihanikirije ngo arinde neza

Paulo na Sila, maze ati nta kindi gihano bampa atari urupfu kuko baza kwibaza ko ntakoze igikorwa canje. N'agahinda kenshi mu mutima yumva ko vyomubera vyiza yiyishe hako yopfa urwo agashinyaguro. Asokoye inkota ngo yiyahure, niho yumva ijwi rya Paulo rivuga amajambo ahumuriza, ati «Ntiwigirire nabi: kuko twese turi hano.» Umuntu wese yari mu kibanza ciwe, afashwe n'ubushobozi bw'Imana bwiyerekanira mu wo bapfunganywe.

Uburyo uwo murinzi yari yasesereje intumwa ntibwatumye biyumvira kwihora. Paulo na Sila bari bafise Mpwemu wa Kristo, nta mutima wo kwihora bari bafise. Imitima yabo, yari yuzuye [113] urukunde rw'Umukiza, nta kibanza c'ububisha yari ifitiye ababahama. Wa murinzi yasokoye inkota yiwe, ahamagaza imuri, yitera mu nzu. Vifuza kubona ingene abo bantu bameze, bamusubirije mu ndumane ku bibi yari yabagiriye. Ashitse mu kibanza intumwa zarimwo, yikubita imbere yabo, abasaba imbabazi.Nuko abasohokana hanze arababaza, ati Bagenzi, nkwiye gukora iki ngo nkire?

Uwo murinzi w'ibohero yari yahinze umushitsi abonye uburake bw'Imana bwigaragarije muri nyamugiginfa; igihe yibaza ko abafungwa batorotse yari yiteguye kwiyahura; ariko noneho ivyo vyose yabonye ko ari ibintu bito abigereranije n'ibishasha, bitangaje vyabogaboga mu bwenge bwiwe, n'icifuzo ciwe co kugira umutekano n'umunezero intumwa zerekanye ziriko zirababazwa, mbere n'uguhohoterwa. Yabonye mu maso habo umuco w'ijuru; yabonye ko Imana yahahagaze mu buryo bw'igitangaza ngo irokore ubuzima bwabo; maze amajambo wa mwigeme afise dayimoni yavuga yikubita mu bwenge bwiwe: «Aba bantu ni abasavyi b'Imana isumba vyose, kandi batubarira inzira y'agakiza.» Basaba bicishije bugufi intumwa ngo zibereke inzira y'ubugingo. «Izere Umwami Yesu, urakira mwe n'abo mu nzu yawe,» niko bamwishuye; maze baherako bamubwira ijambo ry'Umwami, we n'abo mu nzu yiwe bose.» Nuko uwo murinzi w'ibohero aherako yuhagira inguma z'intumwa, arazigaburira, hanyuma baramubatiza, we n'abo mu nzu yiwe bose. Akamoto keranda gakwiragira mu bari mw'ibohero bose, maze bose buguruka imitima bumviriza ukuri izo ntumwa zavuga. Batahuye ko Imana abo bantu basenga yari yababohoye mu buryo bw'igitangaza.

Abantu b'i Fihpi bari batewe ubwoba na nyamugigima, maze igihe bukeye abacamanza b'ibohero bababwira ivyabaye mw'ijoro,

bagira ubwoba, maze barungika abagendanyi kubohora intumwa. Ariko Paulo abishura, ati «Badukubitiye imbere y'ishengero, ata kidutsinze kandi turi Abaroma, kandi badushira mw'ibohero; none bashaka kuduhinda mu mpisho? Ekaye, ni babe ari bo biyizira ubwabo badusohore.» Intumwa zari zifise ubwenegihugu bwa Roma, kandi vyari bibujijwe n'amategeko gukubita Umuroma, kiretse yakoze icaha gikomeye cane,canke kumubuza umwidegemvyo ata rubanza rwamutsinze. Paulo na Sila bari baboshwe bafunzwe ku mu garagaro, niko kwanka kurekurwa mu mpisho bataronse ubusobanuro buvuye ku bacamanza. Ayo majambo ashitse mu matwi y'abategetsi, baciye bagira ubwoba bibaza ko intumwa zohava zitwara ku mwami, nuko babanza kwinjira mw'ibohero, basaba imbabazi Paulo na Sila kuko babarenganije kandi bakabagirira nabi, ndetse babikurira bo nyene mw'ibohero, babinginga kuva mu gisagara. Abacamanza batinya kuko intumwa zari zizwi neza n'abantu, kandi batinya ubushobozi bwari bwarwaniye abo bantu
[114] b'inziramugayo. Intumwa zakurikije impanuro za Kristo, zo kutihambirira kuguma ahantu bidakenewe. «Bavuye mw'ibohero, baja kwa Ludiya, barinjira; bamaze kubona bene Data, barabahanura, bavayo.»

Intumwa ntizafashe ko igikorwa cazo i Ftfipi ari impfagusa. Bari bahwanye n'intambamyi nyinshi, hamwe n'agahamo; ariko ukuboko kw'Imana kuri bo, n'ihinduka rya wa murinzi w'ibohero n'abo mu nzu yiwe bose, vyacunguye kure cane igorane n'imibabaro bari baciyemwo. Inkuru y'ingene baboshwe ata caha bagirizwa, n'uburyo bw'igitangaza babohowemwo, vyakwiragiye mu karere kose, maze bituma igikorwa c'intumwa kimenyekana ku bantu benshi batari gushikirwa mu bundi buryo. Ibikorwa vya Paulo i Filipi, vyavyaye ishengero abizera baryo baciye biyongera bidatevye. Umwete n'ukwitanga vyiwe, ikiruta vyose, kwemera kubabazwa ku bwa Kristo, vyakoze ku mitima y'abizera basha ku buryo batazovyibagira. Bishimira cane uko kuri kutagia akagero intumwa zemeye kwitangira, maze bitanga batiziganije ku bwo igikorwa c'Umukiza wabo.

Kuba iryo shengero ritakize agahamo vyerekanwa mw'ikete Paulo yabandikiye. Avuga ati, «Kuko ico mwahawe mwagabiwe ku bwa Kristo, atari ukumwizera gusa, ariko mwagabiwe no kubabazwa kubwiwe, muri muri ya ntambara mwambonanye.» Ariko yabivuga

bivuye ku mutima,ku buryo yavuze ati, «Nshima Imana yanje, uko mbibutse kwose, kandi uko nsenze kwose mbasengera mwese, kuko mwafatanije nanje gukwiza ubutumwa bwiza, muhereye ku musi wa mbere, mugashitsa n'ubu.» Ab'i Filipil:29, 30, 3-5.

Intambara ibera hagati y'ikibi n'iciza irakomeye cane, mu bisagara binini, iyo intumwa z'ukuri zihamagawe kuhakorera. Paulo avuga ati, «Kuko abo tunigana atari abo inyama n'amaraso, ariko tunigana n'abakuru n'abafise ububasha n'abaganza iyi si y'umwiza, n'impwemu mbi z'ahantu ho mw'ijuru.» Abanyefeso 6:12. Gushika ku muhero w'isi, hazokwama hari intambara hagati y'ishengero ry'Imana n'abakoreshwa n'abamarayika babi.

Abakristo ba mbere basabwa kenshi guhangarana n'inkomezi z'umwiza, imbona nkubone. Mu buryo bw'ubuhendanyi n'agahamo, umurwanizi agerageza kubakura ku kwizera nyakuri. Muri iki gihe, ubwo umuhero wa vyose wegereza vuba, Satani akoresha inkomezi za nyuma ngo yifatire isi yose. Akora imigambi myinshi ngo asamaze abantu kandi abajane kure y'ukuri ngenderwako kw'agakiza. Mu bisagara vyose abakozi biwe bakora ubugahumeka, batondesha mu mirwi abantu barwanya amabwirizwa y'Imana. Uwo mubeshi karuhariwe akora cane yinjiza ibintu bisha vyo guteza akajagari n'ubugarariji, kandi abantu bazigirijwe n'umwete udahwanye n'ukuri. Ububi buriko bushikira urugero rutigeze rushikwako, ariko [115]
kandi abavugabutumwa benshi basemerera bavuga ngo «Amahoro n'umutekano ni vyose.» Ariko intumwa z'Imana z'intungane zitegerezwa gukomeza igikorwa cazo. Bambaye ubwiza bw'ijuru, bategerezwa gutera baja imbere kandi banesha, ntibidohore mu rugamba, kugeza aho abantu bose bashobora gushikira baronka ubutumwa bwiza bw'iki gihe.

## Ikigabane ca 22 : Tesalonike

*Iki kigabane Gishimikiye ku Vyakozive n'Inttimwa 17:1-10.*

Bamaze i Filipi, Paulo na Sila bafashe inzira baja i Tesalonike. Aho baharonkeye amahirwe yo kuvugana n'abantu benshi mw'isinagogi y'Abayuda. Mu maso habo hagaragara amakuba ateye isoni bari baherutse gucamwo, kandi vyasaba yuko basobanura ivyabaye. Ivyo babikoze ata kwishira hejuru kurimwo, ahubwo baninahaje Umwami yabakuye mu mvuto.

Mu kubwira ubutumwa abo i Tesalonike, Paulo yifashishije ivyo abavugishwa n'Imana bavuze kuri Mesiya. Kristo mu gikorwa ciwe yari yuguruye ubwenge bw'abigishwa ngo batahure ubwo buhanuzi; «Atangurira kuri Mose no ku bavugishwa n'Imana bose, abasobanurira mu vyanditswe vyose ivyanditswe kuri we.» Luka 24:27. Petero igihe yavuga ivya Kristo yari yatanze ivyemezo vyiwe akurikije iyo nzira nyene. Na Paulo nyene mu gikorwa ciwe yerekanye ivyanditswe vyabura ukuvuka, imibabaro, urupfu, izuka n'iduzwa mw'ijuru rya Kristo. Akoresheje igishingantahe c'ivyanditswe vyera vyavuzwe na Mose n'abavugishwa n'Imana, yerekanye neza ko Yesu umunyanazareti ari we Mesiya kandi ko uhereye igihe ca Adamu ijwi rya Kristo ryari ryavugiye mu bakurambere n'abavugishwa n'Imana.

Imburi zigaragara kandi zitomoye zerekeye ukuza k'Uwasezeranywe zari zaratanzwe. Adamu yari yahawe isezerano ry'Umukiza azoza. Amajambo y'urubanza yabwiwe Satani ngo «Nzoshira inyankane hagati yawe n'uyu mugore, no hagati y'uruvyaro rwawe n'urwiwe: ruzogukomeretsa umutwe, nawe uzorukomeretsa igitsintsiri» (Itanguriro 3:15), yari ku bavyeyi bacu ba mbere isezerano ry'agakiza kazobonekera muri Kristo. Aburahamu yahawe isezerano ko Umukiza w'isi azova mu ruvyaro rwiwe: «Kandi mu ruvyaro rwawe ni ho amahanga yose yo mw'isi azoherwa umugisha.» «Ntiyavuze, iti imvyaro nk'uwuvuga imvyaro nyinshi, ahubwo yavuze uruvyaro

rumwe, ati ni uruvyaro rwawe; ni rwo kristo.» Itanguriro 22:18; Ab'i Galatiya 3:16.

Mose, agiye kurangiza igikorwa ciwe nk'umurongozi n'umwigisha [116] w'Isirayeli, yatanze ku mugaragaro imburi ko Mesiya azoza. «Uhoraho Imana yanyu azobahagurukiriza uvugishwa na we ameze nka nje, ava muri mwebwe, mu bo i wanyu: aze abe ari we mwumvira.» Kandi Mose wenyene yemangiye ab'Isirayeli ko Imana yonyene ubwayo yamuhishuriye ivyo igihe yari ku musozi wa Horebu, avuga ati, «Nzobahagurukiriza uwuvugishwa nanje ava mu bo iwabo, ameze nkawe; ati nzoshira amajambo yanje mu kanwa kiwe, nawe azobabarira ivyo nzomutegeka vyose.» Gusubira mu Vyagezwe 18:15,18. Mesiya yategerezwa kuva mu muryango w'abami, kuko mu buhanuzi bwavuzwe na Yakobo Uhoraho yavuze ati: «Icumu ry'ubugabe ntirizova kuri Yuda, inkoni yo kuganza hagati y'ibirenge vyiwe, Nyene vyo ataraza: Uwo niwe amahanga azokwumvira.» Itanguriro 49:10. Yesaya yavugishijwe ngo: «Ku gishitsi ca Isayi hazobaduka agashami, kandi umunago wanaze mu mizi yiwe uzokwama.» «Ni mutege amatwi, muze kuri jewe; munyumve, niho ubugingo bwanyu buzobaho; nanje nzosezerana namwe isezerano ritazoshira, ni ryo mbabazi Dawidi yasezeraniwe ritazovaho. Raba, ndamutanze ngo abe icabona co gushingira intahe amahanga, ngo abe n'umukuru na segaba w'amahanga. Raba, uzohamagara ihanga utazi, kandi n'iryari ritakuzi rizokwirukirako, ku bwo Uhoraho Imana yawe, no ku bwo Uwera w'Abisirayeli, kuko azoba aguhaye icubahiro.» Yesaya 11:1; 55:3-5.

Yeremiya na we nyene yarashingiye intahe Umucunguzi azoza nk'Umutware w'inzu ya Dawidi: «Raba imisi izoza, ni jewe Uhoraho mbivuze, nzonagisha kuri Dawidi uwitwa Shami w'umugororotsi, kandi azoganza nk'umwami, agire ikiganza ciza, ace iziroranye n'izibereye mu gihugu. Mu gihe ciwe Abayuda bazokwitwa, ngo Uhoraho niwe kugororoka kwacu.» Arongera kandi ati: «Kuko uko ari ko mvuze, jewe Uhoraho, nti Dawidi ntazokwigera abura uwo kuzokwama ku ngoma yiwe, aganza abo inzu ya Isirayeli. N'abaherezi b'Abalewi n'uko, ntibazokwigera babura uwo kuzokwama ahagarara imbere yanje ngo atange ibimazi avyose, ngo yose n'ibishikanywe, no kwama akerera ibimazi.» Yeremiya 23:5, 6; 33:17,18.

Mbere n'aho Mesiya azovukira harabuwe: «Ariko wewe, Betelehemu Efurata, naho uri inkehwa mu bihumbi vy'i Buyuda, muri wewe hazomviramwo uwuzoba segaba mu Bisirayeli; amamo yiwe yahera kera hose, ibihe n'ibindi.» Mika 5:2.

Igikorwa Umukiza yategerezwa gukora kw'isi cari carashizwe ku rutonde neza neza: «Mpwemu w'Uhoraho azoba kuri we, impwemu y'ubwenge n'iy'ugutahura, impwemu yo kuja inama n'iy'ubushobozi, impwemu y'ukumenya Uhoraho n'iy'ukumwubaha.»Uwo yasizwe yategerezwa «kubwira abaciye bugufi ubutumwa bwiza; . . . gutubika imitima imenetse, no kumenyeshwa abarindwa ko barekuwe, n'imbohe ko zugururiwe; ngo menyeshe abantu
[117] umwaka wo kwemererwamwo n'Uhoraho, n'umusi wo kwihora w'Imana yacu; ngo nirure abagandaye i Siyoni igitsibo mu gishingo c'umunyota, ndabahe n'amavuta y'akaneza mu gishingo c'ukugandara, n'umwambaro wo guhimbaza mu gishingo c'umutima uhondobereye; kugira ngo baze bitwe ibiti vy'ukugororoka, imyeloni yatewe n'Uhoraho, ngo bimutere icubahiro.» Yesaya 11:2, 3; 61:1-3. «Nguyu umushumba wanje; uwo nama nshigikiye, uwo natoranije, ahimbara umutima wanje: nashize Mpwemu wanje kuri We;» azoshikana amateka mu banyamahanga. Ntazoyogora, ntazosemerera, kandi ntazokwumvikanisha ijwi mu nzira. Ntazohohosha irenga rivunitse, n'urumuri ruyenga ntazoruzimya: azoshikana amateka vy'ukuri.

Ntazodendebukirwa, gushitsa aho azoshingira amateka mw'isi; ababa ku kiyaga bazokwitega ivyagezwe vyiwe.» Yesaya 42:1-4.

Paulo n'ubushobozi bwemeza abantu yakoresheje Isezerano rya Kera avuga ko «Kristo ari ngombwa ko ababazwa, kandi akazuka mu bapfuye.» Mbega Mika ntiyari yaravugishijwe ko «Umucamanza w'Abisirayeli bazomukubita inkoni kw'itama?» Kandi Uwo yasezeranye we ubwiwe, biciye mu kanwa ka Yesaya, ntiyatanze imburi avuga ivyiwe ati, «Abankubita nabategeye ibitugu, n'imisaya ndayitegera abamomora ubwanwa.kandi mu maso hanje sinahakinjishije guteterezwa no gucirwako amate?» Yesaya 50:6. Biciye mu munyezaburi, Kristo yarabuye amabi azokorerwa n'abantu: «Ndi . . . sindi umuntu: ndi ruvumwa mu bantu, nkengerwa na bose. Abambona bose bantwengera mw'ijigo: Bampa ibinoko, banzunguriza imitwe Bati Yishize k'Uhoraho ngo azomukiza, none namukize ko amunezererwa.» «Nshobora guharura amagufa yanje yose;

Bandaba bankanuriye amaso. Bagabura impuzu zanje, Bampfindira umwambaro wanje.» «Mpindutse akavantara ku bo tuvukana, na murundi kuri bene mama. Kuko ishaka ry'inzu yawe rindya; ibitutsi vy'abagutuka vyaguye kuri Jewe.» «Ibitutsi vyamenaguye umutima, ndaremerewe cane: Nareretse ko hari uwongirira akagongwe, ntawabonetse; n'uko hari abonyirura, ndabura.» Zaburi 22:6-8,17,18; 69:8, 9,20.

Ni murabe ingene amajambo Yesaya yavugishijwe ku mibabaro n'urupfu vya Kristo yari atomoye ku buryo ata woyihendako! «Uwavugishwa n'Imana arabaza ati ninde yemeye inkuru zacu? Kandi ati «ukuboko kw'Imana kwahishuriwe nde? Kuko yakuriye imbere yiwe nk'ikironge, kandi nk'agashami kava mw'ivu rigadutse: Ntiyari afise ishusho nziza canke igikundiro, kandi aho twamubona ntiyari afise ubwiza bwotumye tumwifuza. Yarakengerwa, agahurwa n'abantu; yari umunyamibabaro, yari azi intimba ico ari co; yakengerwa nk'umuntu abandi bahisha mu maso habo, natwe nta co twamwibajijeko. «Ni ukuri ni izacu ntimba yishizeko, ni iyacu mibabaro yikoreye; ariko tweho twamwiyumviriye nk'uwakubiswe, nk'uwacumiswe n'Imana, akicurikirizwa n'akabonge. Yamara yacumitiwe ivyacu bicumuro, yajanjaguriwe ivyacu bigabitanyo:
igihano kituronkesha amahoro cabaye kuri We, kandi imishishagu [118]
yiwe niyo idukiza. «Twese twazimiye nk'intama, twese twagiye isabagire, umuntu wese mu nzira yiwe; Uhoraho amuremeka ukugabitanya kwacu twese. Yaracuranguzwa, yamara akarendeka, ntiyakurako umunwa; nk'umwagazi w'intama ujanwa mw'ibagiro, canke intama itekerereza imbere y'abayikemura, ni ko atakuyeko umunwa. Yakuweho no kugirirwa nabi no gutsindishwa; mu bo mu runganwe rwiwe ni nde yabishizeko umutima ko yakuwe mw'isi y'abakiriho? Ibicumuro vy'abantu ni vyo yakubitiwe.» Yesaya 53:1-8.

Mbere n'ingene azopfa vyari vyarabuwe. Nk'uko inzoka y'umuringa yari yaramanitswe mu bugaragwa, ni ko n'Umukiza azoza yategerezwa kumanikwa, «kugira ngo uwumwizera wese ntazopfe rubi, ahubwo ahabwe ubugingo budashira.» Yohana 3:16. «Kandi bamubajije bati Izo nguma zo mu biganza vyawe ni izo iki? Nawe azobishura, ati Ni izo nakomerekeye mu nzu y'abakunzi banje.» Zekariya 13:6. «Bageze ko ahambwa hamwe n'abanyavyaha, asangira imva n'umutunzi mu gupfa kwiwe; naho ata kibi yakoze, kandi ata guhemana kwari mu kanwa kiwe. Yamara

Uhoraho yashimye kumujanjagura, yaramubabaje.» Yesaya 53:9, 10. Ariko uwari agenewe kubabara akicwa n'abanyakibi, yategerezwa kuzuka nk'uwanesheje icaha n'urupfu. Biciye mu guhumekerwa guhambaye, wa Muririmvyi Rurangiranwa w'Isirayeli yashingiye intahe ubwiza bw'igitondo c'umuzuko. Yatangaje ati «Kandi n'umubiri wanje, uzoba ahatari inkomanzi. Kuko utazoreka ubugingo bwanje ngo buje i kuzimu, kandi ntuzokundira Uwera wawe ngo azobore.» Zaburi 16:9, 10. Paulo yerekanye ingene Imana igereranya imihango y'ibimazi n'ivyavuzwe n'abavugishwa n'Imana vyerekeye wa wundi yategerezwa «kuzanwa nk'umwagazi w'intama uzanwa ku wuyikerera.» Uwo Mesiya yategerezwa gutanga ubugingo bwiwe nk'«ikimazi c'ivyaha.» Aravye mu binjana bizoza ibijanye n'imponganо y'Umukiza, Uwavugishwa n'Imana Yesaya yari yashinze intahe ko Umwagazi w'Imana «yasutse ubugingo bwiwe akageza ku gupfa: kandi yahawe umugabane n'abanyavyaha; kandi yiremetse ivyaha vya benshi, kandi yasabiye abanyavyaha.» Yesaya 53:7,10,12.

Umwami avugwa mu vyanditswe n'abavugishwa n'Imana yagira aze, atari umwami w'igihe gito aje kubohora Abayuda mu gahotoro k'ab'isi, ahubwo nk'umuntu mu bandi, akabaho nk'umworo n'uwiyorosha, kandi ku mpera ya vyose agakengerwa, akankwa, kandi akicwa. Umukiza yabuwe mw'Isezerano Risha yategerezwa kwitanga nk'ikimazi ku bwo abantu baguye mu caha, gutyo agashitsa ikintu cose gisabwa n'ivyagezwe vyahonyanzwe. Muri we ibimazi vyategerezwa gusubirirwa n'uwo vyagereranya, kandi urupfu rwiwe ku musaraba rwategerezwa kugira ubusobanuro bukomeye ku bikorwa vy'imihango y'Abayuda. Paulo yabwiye Abayuda b'i Tesalonike ingene yahoze arwanira imihango
[119] y'ivyagezwe n'ivyamushikiye kw'irembo ry'i Damasiko. Atarahindukirira Kristo, yari yishimiye ubugororotsi bw'amamuko yiwe, ivyizigiro bitagira ishingiro. Ukwizera kwiwe ntikwari gushingiye kuri Kristo; ahubwo, yari yizeye ubugororotsi bwo hanze, n'imihango y'idini. Umwete wiwe w'ivyagezwe ntiwari ufatanye n'ukwizera Kristo kandi wari imburakimazi. Ubwo yiyemera ngo nta gasembwa afise mu bikorwa bisabwa n'ivyagezwe, yari yaranse Uwuha ivyagezwe agaciro. Ariko igihe yahindukirira Kristo, vyose vyarahindutse. Yesu Umunyanazareti, uwo yahoze ahama mu guhiga abera, yamubonekeye nka Mesiya yasezeranywe. Uwo yahiga abiz-

era Yesu nk'Umwana w'Imana, uwari yaje kw'isi ngo asohoze ivyanditswe n'abavugishwa n'Imana kandi ubuzima bwiwe bukaba bwari buhuye neza n'Ivyanditswe Vyera.

Ubwo Paulo yamamaza ubutumwa bwiza mw'isinagogi i Tesalonike afise ubushizi bw'amanga bweranda, vyatumye abantu batahura neza ubusobanuro bw'ibikorwa n'imihango vyakorerwa mw'ihema ry'ibonaniro. Yakuye imitima y'abamwumviriza ku vyakorerwa mw'ihema ryo kw'isi, aberekeza ku gikorwa Kristo akorera mw'ihema ryo mw'ijuru, muri ca gihe, Kristo amaze kurangiza igikorwa co kudusengera, azogaruka n'ubwiza n'ubushobozi bwinshi, maze agashinga ubwami bwiwe kw'isi. Paulo yizera ukugaruka kwa Kristo; nuko rero yerekana kandi ashimitse ukuri kujanye n'ico kintu, ku buryo ivyo vyiyanditse burundu ku mitima y'abamwumvirije. Paulo yavuze ubutumwa bwiza i Tesalonike Amasabato atatu akurikirana, abumvisha akoresheje Ivyanditwe bivuga ku buzima, ku rupfu, izuka, igikorwa, n'ubuninahazwa buzoza bwa Kristo, «Umwagazi w'intama w'Imana yabazwe uhereye isi ikiremwa.» Ivyahishuriwe Yohana 13:8. Yashize hejuru Kristo, uwo ugutahura kw'igikorwa ciwe ari urufunguruzo rwo kwugurura Isezerano rya Kera, umuntu agashikira ubutunzi bwaryo.

Ubwo ukuri kw'ubutumwa bwiza kwamamazwa n'ubushobozi bwinshi i Tesalonike, abantu benshi babuteze amatwi. «Bamwe muri bo birabemeza, bifatanya na Paulo na Sila, n'ishengero ryinshi ryo mu Bagiriki bubaha Imana, n'abagore b'icubahiro batari bake.» Nk'uko vyabaye mu bindi bibanza binjiyemwo imbere y'aho, intumwa zararwanijwe bikomeye.

«Abayuda batakiriye ukwizera bagira ishari.» Abo Bayuda ico gihe ntibari bifatanije n'ubutegetsi bwa Roma, kuko, imbere y'aho gato bari bateye umugumuko mu gisagara ca Roma. Barabinuba, kandi umwidegemvyo wabo waragenzurwa cane. Baboneraho rero akaryo ko kwiyuzuza na Roma, n' ugutukisha intumwa n'abakiriye idini ya Kristo.

Ibi babishitseko mu kubanza kwiyunga «n'abagabo babi bo muri ba nyarucari» maze muri ubwo buryo «batera imigumuko mu gisagara.» Kubera barondera Paulo na Sila, «batera inzu ya Yasona;» ariko ntibashobora kuronka Paulo na Sila. «Bababuze, bakwegera Yasona na bene Data imbere y'abaganza igisagara, barasemerera, bad Abateye isi yose umugumuko bashitse n'ino, kandi Yasona [120]

yabahaye indaro: abo bose barenze ivyagezwe vya Kayisari, bavuga yuko hari uwundi mwami, ngo ni Yesu.» Babonye babuze Paulo na Sila, abacamanza baterera mu mvuto abo bizera baregwa, bitwaza imvo y'umutekano. Ku bwo gutinya iyindi migumuko, «bene Data banyuruza Paulo na Sila mw'ijoro baja i Beroya.» Abigisha uyu musi ukuri kudakundwa na benshi ntibakwiye gucika intege igihe bahwanye n'intambamyi bakanka kubakira, n'aho hoba ari mu biyita Abakristo, nk'uko vyashikiye Paulo na bagenziwe bo mu bantu bakoreramwo. Intumwa z'umusaraba zitegerezwa kwama zigavye kandi zisenga, zigenda zija imbere mu kwizera no gushikama, zikora na ntaryo mw'izina rya Kristo. Zitegerezwa gushira hejuru Kristo nk'uwusengera abantu mw'ihema ryo mw'ijuru, uwo muri We ibimazi vyose vyo mw'Isezerano rya Kera vyari bihagazeko, kandi akaba ari mu kimazi c'impongano yiwe abanyavyaha baronkeramwo amahoro n'imbabazi.

## Ikigabane ca 23: Beroya Na Atenayi

*Iki kigabane Gishimikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 17:11-34.*

I Beroya Paulo yahasanze Abayuda bifuza kugenzura ukuri yigishije. Amajambo yanditswe na Luka avuga kuri bo ati: «Abo bari imico myiza kuruta abo i Tesalonike, kuko bakiriye ijambo ry'Imana n'umutima ukunze, basesa mu vyanditswe uko bukeye, ngo bamenye yuko ivyo ari ivyo ukuri. Nuko benshi muri bo barizera, n'abagore b'icubahiro b'Abagirikikazi n'abagabo batari bake.»Ubwenge bw'abantu b'i Beroya ntibwari bwarahumishijwe n'ivyiyumviro vy'ubuhumvyi. Baremera kugenzura ukuri kw'inyigisho z'intumwa. Bariga Bibihya, batabitewe no gusoma urusaku, ahubwo bifuza kwiga ivyari vyaranditswe kuri Mesiya yasezeranywe. Buri musi barasesangura ivyanditswe vyera, kandi uko bagereranya ivyanditswe n'ibindi, abamarayika bo mw'ijuru baba i ruhande yabo, bamurikira ubwenge bwabo kandi bakora ku mitima yabo. Aho hose ukuri kw'ubutumwa bwiza kuvugwa, abifuza gukora ibiroranye barongorwa kwiga neza Ivyanditswe. Iyo aba, mu misi irangiza ibihe vy'iyi si, abo babwirwa ukuri guhambaye bokurikiza akarorero k'Abanyaberoya, bagasesangura mu Vyanditswe buri musi, kandi bakagereranya ijambo ry'Imana n'ubutumwa bazaniwe, hobaye uyu musi abantu benshi bibohera ku mategeko y'ivyagezwe vy'Imana, mu mwanya wo kuba bake nk'uko biri muri iki gihe. Ariko, iyo ukuri kudahurumbirwa na benshi kwa Bibiliya gushikirijwe, benshi banka gukora ubwo bushakashatsi. Naho badashobora kuvuguruza inyigisho zigaragara z'Ivyanditswe Vyera, berekana ko badashaka kwiga ibimenyamenya bitangwa. Bamwe bavuga yuko naho izo nyigisho ari izo ukuri koko, ntaco bitwaye kwakira umuco musha canke kureka, mazebakibohera ku [121]
binyoma umwansi akoresha mu kuzimiza abantu. Gutyo rero ubwenge bwabo bugahumishwa n'ikinyoma, bagatandukana n'ijuru.

Abantu bose bazocirwa urubanza hakurikijwe umuco baronse. Umwami arungikana Ivyariho vyiwe ubutumwa bw'agakiza, kandi

azobabaza ingene bangenjeje amajambo y'Abashumba biwe. Abarondera ukuri ata buryarya barasesangura, bisunze umuco w'ijambo ryTmana, inyigisho bashikirizwa.

Abayuda bahakanye Kristo b'i Tesalonike, bagiriye ishari n'inzigo intumwa, kandi nk'uko umengo batanyuzwe n'ukubirukana mu gisagara cabo, babakurikiranye i Beroya kandi babagumurirako abantu b'ibirandamuke bo muri banyarucari. Kubera gutinya ko bosimbira kuri Paulo igihe yoguma mu gisagara, bene Data bamurungitse i Atenayi, aherekejwe na bamwe mu Banyaberoya bari baherutse guhindukirira Imana. Nuko rero agahamo gakurikira abo bigiSha b'ukuri muri buri gisagara. Abansi ba Kristo ntibashobora kubuza ko ubutumwa bwiza buja imbere, ariko barashoboye kunaniza cane intumwa mu gikorwa cazo. Ariko n'ubwo babarwanije bakabananiza, Paulo yarakomeje, afise intumbero yo gushitsa umugambi Imana yamuhishuriye mu nzozi ari i Yerusalemu: «Nzogutuma kure ku banyamahanga.» Ivyakozwe n'Intumwa 22:21. Kuva i Beroya ihutihuti vyabujije Paulo akaryo ko kugendera bene Data b'i Tesalonike nk'uko yari yavyifuje.

Ashitse i Atenayi, iyo ntumwa yarungitse bene Data b'i Beroya bajanye ubutumwa bashira Sila na Timoteyo ngo bihutire kumusangayo. Timoteyo yari yarigeze gushika i Beroya imbere y'uko Paulo agenda, kandi we na Sila bari bagumyeyo babandanya igikorwa cari catanguye yo, n'ukwigisha abizera basha amategeko y'uko kwizera. Igisagara ca Atenayi cari icicaro c'ubupagani. Aho ho Paulo ntiyahuye n'abantu ataco bazi bo muri banyarucari, nk'i Lusitira, ahubwo yahuye n'abantu rurangiranwa mu bwenge no mu mico kama. Ahantu hose harangwa n'ibishushanyo vy'imana zabo n'abantu rurangiranwa bo muri kahise n'abanditsi b'imvugo iryoboye, bafatwa nk'utumana, inyubakwa z'igitangaza n'amasanamu vyagaragaza ubwiza bw'igihugu n'ugusenga kwa gipagani kwakundwa n'abanyagihugu nka bose. Amaso y'abantu yasamazwa n'ugukayangana kw'utugenegene.

Ahantu hose n'ibibanza vyeranda n'ingoro z'imana, vyatwaye amahera y'umurengera, haboneka ibishusho vyabo. Intsinzi zabo z'intambara n'ibikorwa vy'abantu bahambaye vyahimbazwa n'ibishushanyo, ibibanza vyeranda, n'inzandiko zo ku mabuye. Ibi vyose vyatuma Atenayi iba ihayiro ry'ubuhinga n'utugenegene. Paulo yihweje ubwiza n'icubahiro bimuzungurutse kandi ak-

abona n'igisagara cihebeye ugusenga ibigirwamana, umutima wiwe wuzuye ifuhe ntangere ku bwo Imana, yabona ko ikengerewe ku mpande zose, maze umutima wiwe wuzura akagongwe ku bwo Abanyatenayi, batari bazi Imana y'ukuri, n'ubwo bari barize. [122]

Intumwa Paulo ntiyahenzwe n'ivyo yabonye muri ico gisagara c'ihuriro ry'incabwenge. Kamere yiwe y'ivya mpwemu yari ikomeye cane bihagije ku buryo yakwegwa n'umunezero w'ijuru, ubwiza n'ubutunzi bizohoraho ibihe vyose vyahinduye ubusa mu maso yiwe ubutunzi n'ugukayangana vyari hirya no hino. Ubwo yabona ubwiza bwa Atenayi, yatahuye ubushobozi butwara abantu bakunda ubumenyi n'utugenegene, maze atahura mu bwenge bwiwe igikorwa gihambaye cari kimurindiriye. Muri ico gisagara kinini, aho Imana itasengwa, Paulo yumvise irungu ryinshi, maze yifuza impuhwe n'ubufasha bw'abo bakorana.Ku bwo gukumbura abagenzi biwe, yiyumvise cane ko ari wenyene. Mw'ikete yandikiye Abo i Tesalonike, abivuga mu ri aya majambo, avuga uko yiyumva, «Tutagishoboye kwihangana, dushima gusigara muri Atenayi twenyene.» Intambamyi zasa n'umurengera zaje mu vyiyumviro vyiwe, bituma abona ko utwigoro twose yokora ngo ashikire imitima y'abantu twoba impfagusa.

Igihe yari arindiriye Sila na Timoteyo, Paulo ntiyareze amaboko. «Yahaririye . . . n'Abayuda n'abubaha Imana mw'isinagogi, na mu kaguriro imisi yose aharira n'abamusangaho.» Ariko igikorwa nyamukuru ciwe muri Atenayi categerezwa kuzanira inkuru nziza y'agakiza ku bantu batiyumvira Imana n'umugambi wayo wo gukiza abantu baguye mu caha mu bwenge bwa kimuntu. Iyo ntumwa yari yiteze guhura n'ubupagani butagira uko buvugwa. Abantu bahambaye b'i Atenayi ntibatevye gutahura ko mu gisagara cabo hashitse umwigisha adasanzwe yigisha inyigisho nsha kandi z'ivyaduka. Bamwe muri abo bagabo basohokana Paulo batangura kuganira nawe. Bidatevye abantu babahundarako ngo bumvirize. Bamwe bari biteguye gusuzugura iyo ntumwa nk'umuntu ari hasi yabo, haba mu buryo bwo kubaho canke mu vy'ubwenge, maze babazanya bamutwenga ngo, «Uyu adedemba agomba kuvuga ibiki?» Abandi nabo, kuko «yavuga ubutumwa bwiza bwa Yesu n'ubwo ukuzuka,» bavuga ngo, «Umenga ni uwuzanye Imana z'ivyaduka.»

Muri abo bahuye na Paulo mu kaguriro harimwo «abanyabwenge bitwa Abepikuriyo, n'abandi bitwa Abasitoyiko;» ariko,

bo n'abandi bose bahuye nawe, babona bidatevye ko afise ubumenyi buruta mbere ubwabo. Inkomezi z'ubwenge bwiwe zatumye abo banyabwenge bamwubaha cane; ivyiyumviro vyiwe bitomoye n'ubushobozi bw'amajambo yiwe vyatangaje abantu bose bamumvirije. Batahuye ko atari umukungu, ahubwo ko ashoboye guhangarana n'imigwi y'abantu bose akoresheje amajambo yemeza mu nyigisho yigisha. Nuko iyo ntumwa ihagarara ata bwoba,
[123] avugana n'abamuhaririza akoresheje ivyiyumviro bitwaza, impari z'amajambo zihwana n'izindi, ubwenge buhwana n'ubundi, imvuzi ishwana n'iyindi.

Abo bapagani bamuhaririza bamwereka ubushobozi bwa Socrate, bamwereka ko yapfuye azira ugushira imbere izindi mana, bahanura Paulo kutaroha ubugingo bwiwe mu nzira isa n'iyiwe. Ariko amajambo ya Paulo yakweze abantu, maze ubwenge bwiwe butagira agasembwa butuma bamwubaha kandi baratangarira. Ntiyahojejwe n'ubumenyi canke agahemo k'abanyabwenge, maze kugira ngo binezereze kuko babona yahisemwo gukora icamuzanye, maze ngo avuge inkuru ziwe, bahitamwo kumwumviriza neza. Nuko rero bamujana ahitwa Areyopago. Aho hari hamwe mu bibanza birabwa cane nka vyeranda muri Atenayi hose, kandi hari ivyibutso n'amashirahamwe y'abantu, vyatuma harabwa nk'ahantu heranda kandi hubahwa, mbere bamwe bakaharabana ubwoba. Aho niho abantu bamwe biyita abafise ijambo rya nyuma bakunda kurabira ibibazo bihambaye bijanye n'idini, imibereho canke imibano y'abanyagihugu.

Aho rero, kubera hari kure y'urwamo, rw'ihuriro ry'abantu n'ibihari, iyo ntumwa yashobora kwumvirizwa ata kirogoya. Yakikujwe n'abanditsi b'abahinga, abanyatugenegene, n'abanyabwengeabize n'inararibonye zo muri Atenayi, bamubajije: «Ubona twoshobora kumenya ukwo kwigisha gusha uvuga uko ari kwo? Kuko utuzanye mu matwi ibintu vy'ivyaduka: None turagomba kumenya ivyo ari vyo.» Muri ico gihe gihambaye cane, iyo ntumwa ntiyataye umutwe. Mu mutima wiwe habogaboga ubutumwa buhambaye, kandi amajambo yavuye mu kanwa kiwe yemeje bose ko atagenzwa n'ukudedemba namba. Avuga ati,«Bagabo bo muri Atenayi, mbonye muri vyose ko mukabije mu kwubaha imana zanyu. Kuko aho nagendagenda nitegereza ivyo musenga, nasanze hari n'igicaniro canditsweko, ngo Ico Imana Itazwi. Nuko iyo

musenga mutayizi, ni yo ndababarira.» Naho bari bafise ubwenge n'ubumenyi muri rusangi, ntibari bazi Imana yaremye ijuru n'isi. Ariko kandi hari bamwe bifuza kuronka umuco uruta uwo bafise. Barondera gushikira Iyitagira iherezo. Aramvuye amaboko yerekeza ku rusengero rwuzuye ibigirwamana, Paulo avuga ibiri ku mutima vyose, kandi abereka ubupfu bw'idini ry'Abanyatenayi. Abarusha abandi ubwenge mu bamwumvirije baratangaye ubwo bumva ingene arangurura imvugo n'ivyumviro vyiwe. Yigaragaje nk'umuntu amenyereye ibikorwa vy' ubukorikori bwabo, inzandiko, n'idini ryabo. Akubitije amaso ku bishushanyo n'ibigirwamana vyabo, yabemangiye ko Imana idashobora kugereranywa n'ibishushanyo bikozwe n'amaboko y'umuntu. Ivyo bishushanyo vy'ibibazano ntibishobora na gato kugereranya ubwiza bwa Yehova. Yabibukije ko ivyo bishushanyo bitagira ubugingo, ahubwo ko bitegekwa [124] n'ububasha bw'umuntu, bikaja gusa aho amaboko y'abantu abijanye; abereka ko rero ababisenga barengeye ivyo basenga.

Paulo yerekeje ubwenge bw'abamwumviriza basenga ibigirwamana kure y'idini ryabo ry'ibinyoma, abereka Imana nyakuri, iyo bise ngo ni «Imana itazwi.» Iyo noneho ababwira, ntaho ihwaniye n'umuntu, ntikeneye ubufasha bw'amaboko y'abantu ku bushobozi n'icubahiro cayo. Abantu baratangaye bumvise ingene Paulo arata kamere y'Imana nyakuri-ubushobozi bwayo bwo kurema n'ingene iri hejuru ya vyose. Mu majambo arangurutse kandi ari mu mvugo y'ubuhinga, iyo ntumwa yavuze, «Imana Rurema, yaremye isi n'ibirimwo vyose, iyo, kuko ari yo Mwami w'ijuru n'isi, ntiba mu nsengero zubatswe n'amaboko; kandi ntikorerwa n'amaboko y'abantu, nk'uwuri n'ico akenye, kuko ari yo yahaye bose ubugingo, no guhumeka n'ibindi vyose.» Niba ijuru ridahagije ku Mana, mbega insengero zubatswe n'amaboko y'abantu zozo ni gute!

Muri ico gihe carangwa n'amacakubiri n'ikumira, aho uburengazira bwa kiremwa muntu kenshi bwahonyangwa, Paulo yaberetse ukuri ko abantu bose bavukana, avuga ko Imana «yaremye amahanga yose y'abantu ibakuye mu muntu umwe, ngo basagaze mw'isi yose.» Mu maso y'Imana abantu bose barangana, kandi bategerezwa kugendera musi y'ubugombe ntangere bw'Umuremyi. Hanyuma iyo ntumwa yerekanye ingene, mu vyo Imana ikorera umuntu vyose, ico ishira imbere kuruta ibindi ari ubuntu n'imbabazi zayo. «Yashinze ibihe vy'imyaka ko bikuranwa uko yageze, icira

abantu imbibe z'aho baba; kugira ngo barondere Imana, ngo namba kumbure bakabakavye boyibona, naho itari kure y'umuntu n'umwe muri twebwe.»

Yerekeza ku vyiza biboneka iruhande yiwe, akoresha amajambo y'umwe mu bigeneye indirimbo wo muri bo, yerekana ko Imana ari Data wa twese, nabo bakaba abana biwe. Avuga ati «Muri Yo tubeshejweho, tukagenda, turi n'ubugingo, nk'uko bamwe mu bigeneye indirimbo banyu bavuze, bati Turi uruvyaro rwawe. Nuko rero, ko turi uruvyaro rw'Imana, ntidukwiye kwiyumvira yuko Imana isa n'izahabu, canke ifeza, canke amabuye, ivyabajwe n'ubuhinga n'ubwenge bw'abantu.» Nuko iyo misi y'ubutamenya, Imana yarayirengagije; ariko noneho, igera ko abantu bose aho bari hose bihana.» Mu myaka y'umwiza yabanjirije ukuza kwa Kristo, Umwami Imana yarirengagije ugusenga ibigirwamana kw'abapagani; ariko noneho, biciye mu Mwana wayo, yarungikiye abantu umuco w'ukuri; kandi yiteze ko bose bokwihana bagakizwa, atari gusa mu bakene n'aboroheje, ahubwo no mu banyabwenge, abahambaye n'abaganza b'isi. «Kuko yashinze umusi wo gucirako isi yose amateka y'ukuri, izoyacisha umuntu yatoranije, kandi yahaye bose ikimenyamenya c'ivyo, mu kumuzura mu bapfuye.» Bumvise paulo avuze ivyo ukuzuka mu bapfuye,
[125] «bamwe barishinyira: abandi nabo bati, Tuzoba turumva ukundi ivyo utubarira kuri ivyo.» Uku niko ibikorwa vy'iyo ntumwa vyarangiye i Atenayi, ihuriro ry'abanyabwenge b'abapagani, kuko abo muri Atenayi, bihambiriye ku gusenga ibigirwamana, batera umugongo umuco w'idini nyakuri. Iyo abantu banezerewe ivyo bashitseko mu nkomezi zabo, nta kintu c'ingirakamaro wobitegako. Naho biyemera ngo barize, abantu bo muri Atenayi bakomeza kwononekara mu ngeso, n'ukunyurwa n'amabanga y'ibigirwamana vyabo.

Mu bumvirije amajambo ya Paulo harimwo abanyuzwe n'ukuri, ariko ntibashoboye kwicisha bugufi ngo bizere Imana kandi bakire umugambi w'agakiza. Nta bushobozi bw'amajambo, nta n'ivyiyumviro bihambaye vyoshobora guhindura umunyavyaha. Ubushobozi bw'Imana bwonyene ni bwo bwandika ukuri ku mutima. Umuntu akomeza gutera umugongo ubu bushobozi, ntashobora gukorwako n'ukuri. Abagiriki barondera ubwenge, ariko ubutumwa bw'umusaraba kuri bo bwari ubupfu, kuko bashize ubwenge bwabo bwite hejuru y'ubwenge buturutse mw'ijuru. Ub-

wibone bwo kwishimira ubwenge bwa kimuntu, ni ho havuye intambamyi yatumye ubutumwa butakirwa mu bantu b'i Atenayi. Abanyabwenge b'isi bazokwegera Kristo nk'aboro n'abanyavyaha bazimiye, bazohinduka abanyabwenge bo gukizwa; ariko abo baza nk'abantu badasanzwe, biratira ubwenge bwabo, ntibazoronka umuco n'ubumenyi Imana yonyene ishobora gutanga.PauIo yahuye n'ubupagani bw'igihe ciwe. Ibikorwa vyiwe muri Atenayi ntivyabaye impfagusa. Diyonisiyo, umwe mu banyagihugu bamenyekana, hamwe n'abandi, barakiriye ubutumwa bwiza kandi bifatanya n'abizera. Ijambo ryahumetswe n'Imana ryaduciriye ku mayange ivyerekeye ubuzima bw' Abanyatenayi, bari bazi vyinshi, abanyabwenge, bazi utugenegene, ariko badobereye mu kibi, ngo tubone ingene Imana iciye mu mushumba wayo, yakankamiye ugusenga ibigirwamana, ivyaha vy'ubwibone, n'ukwikunda kw'abo bantu. Amajambo y'iyo ntumwa, n'ingene avuga uko yabonye abo bantu n'igisagara cabo, nk'uko vyandditswe bihumekewe na Mpwemu, vyategerezwa guhererekanwa mu ruvyaro rwose ruzoza, ngo bibe igishingantahe c'ukudahugumba n'ubushizi bw'abanga bwiwe ari wenyene hagati y'abamuvuguruza, n'intsinzi yaronse ku bwo Abakristo bose hagati y'abapagani.

Amajambo ya Paulo yuzuye ubutunzi bw'ubumenyi kw'ishengero. Yari mu kiringo vyari vyoroshe gushavuza abo bantu bamurwanya buzuye ubwibone, maze bikamuteza ingorane. Iyo amajambo yiwe akora mu jisho imana zabo n'abahambaye b'ico gisagara, yari kuja mu kaga bakamugira uko bagize Socrate. Ariko yakoresheje ubwenge bukomoka ku rukundo rw'Imana, yazanye yitonze ubwenge bwabo abukura ku mana za gipagani, mu kubahishurira Imana nyakuri, iyo batari bazi.Uyu musi ukuri kwTvyanditswe [126]
Vyera gutegerezwa kuvugirwa imbere y'abantu bahambaye b'iyi si, kugira ngo bahitemwo hagati yo kwumvira ivyagezwe vy'Imana n'ukwumvira Sekibi. Imana ishira ukuri imbere yabo-ukuri kuzobaha ubwenge bushikana ku gakiza, ariko ntibategeka kukwakira ku nguvu. Iyo bateye umugongo ukuri, irabareka bakajana inzira zabo, ngo bazimbure ivyamwa vy'ibikorwa vyabo. Kuko ijambo ry'umusaraba ku bahona ari ubupfu, ariko kuri twebwe abakizwa ni ubushobozi bw'Imana. Kuko handitswe ngo, Nzohonya ubwenge bw'abanyabwenge, n'ubuhanga bw'abahanga nzobuhindura ubusa.» «Imana yatoranije ibipfu vyo

mw'isi, ngo imaramaze abanyabwenge: kandi yatoranije ibinyantege nke vyo mw'isi ngo imaramaze ibikomeye; kandi n'ivyoroheje vyo mw'isi, n'ibikengerwa, mbere n'ibitariho, Imana yarabitoranije ngo ititure ibiriho.» 1 Ab'i Korinto 1:18, 19, 27, 28. Benshi mu banyabwenge n'abategetsi b'ibihugu, abahambaye bo muri iyi si, mu misi y'imperuka bazotera umugongo umuco kubera ubwenge bw'isi butazi Imana. Ariko abashumba b'Imana bategerezwa kurondera akaryo kose gashoboka ngo bashikirize ukuri abo bantu. Bamwe bazokwemera ko batazi ivy'Imana kandi bazofata ikibanza cabo maze bige nk'abigishwa biyoroheje ku birenge vya Yesu, Umwigisha w'Abigisha. Mu kigoro kose ko gushikira abantu bo mu vyiciro vyo hejuru, umukozi w'Imana akeneye ukwizera gukomeye.

Ivyo amaso abona bishobora gusa n'uko vyoba intambamyi, ariko mu gihe c'umwiza w'umuzitanya, hari umuco uva hejuru. Inkomezi z'abakunda kandi bagakorera Imana zizoba nsha umusi ku musi. Ugutahura kwTmana itagira iherezo kuri mu maboko yabo, kugira ngo ntibihende igihe bashitsa imigambi yayo. Reka abo bakozi bumire ku kwizera kwabo kuva ku ntango gushika kw'iherezo, bibuka ko umuco w'ukuri kw'Imana utegerezwa gukayangana hagati y'umwiza utwikiriye isi yacu. Nta kwihebura gutegerezwa kuba mu gikorwa c'Imana. Ukwizera kw'umukozi yitanze gutegerezwa kwihanganira ikigeragezo cose. Imana irashoboye kandi yifuza guha abashumba bayo inkomezi zose bakeneye, no kubaha ubwenge bakeneye mu bihe vyose. Izokora n'ibirengeye ivyo abamwizeye biteze.

## Ikigabane ca 24: Korinto

*Iki Kigabane Gishmikiye ku Vyakozwe n'Intumwa 18:1-18*

Mu kinjana ca mbere inyuma ya Kristo, Korinto cari kimwe mu bisagara bikomeye, atari mu Bugiriki gusa, ahubwo no mw'isi yose. Abagiriki, Abayuda n'Abaroma, hamwe n'ingenzi ziva mu turere twose, buzura mu mabarabara yaho, bagenzwa n'urudandaza no kwinezereza. Igisagara gikomeye mu rudandaza, kigize ihwaniro ry'amayira ava mu mihingo yose y'ubwami bwa Roma, cari ikibanza [127] gihambaye co gushingamwo ivyibutso vy'Imana n'ukuri kwayo. Mu Bayuda bari bacumbitse muri Korinto harimwo Akwila na Purisikila, bahavuye baba abakozi bakomeye ba Kristo. Amaze kumenyera ingeso z'abo bantu, Paulo «abana na bo.» Mu ntango y'ibikorwa vyiwe muri urwo rugendo, Paulo yagenda ahwana n'ingorane zikomeye zimubuza gutera imbere mu gikorwa ciwe. Igisagara nka cose cari cihebeye gusenga ibigirwamana. Venusi yari imana y'ingore kizigenza, kandi muri uko gusenga Venusi bafatanya n'imigenzo n'imihango iteye isoni. Abanyakorinto bari barabaye rurangiranwa, no mu bapagani, kubera ubusambanyi bwabo bwimonogoje. Bisa n'uko i ruhande y'ukwiryohererwa n'ukwinezereza ata kindi kintu biyumvira muri iki gihe.

Mu gushikiriza inkuru nziza muri Korinto, Paulo yakurikije uburyo butandukanye n'ubwaranze ibikorwa vyiwe muri Atenayi. Muri Atenayi yagerageje kwisunga ingeso z'abamwumviriza; yakoresheje ubuhinga bw'ivyiyumviro nk'uko nabo babikora, ubumenyi ku bumenyi, ubwenge ku bundi. Yiyumviriye gato ku mwanya yamaze i Atenayi, yatahuye ko inyigisho ziwe zitazanye ivyamwa vyinshi, maze ahitamwo gukoresha iyindi nzira mu gikorwa ciwe i Korinto, mu twigoro twiwe two gukwegakwega abantu ataco bitayeho. Yigiriye inama yo kudakoresha ubuhinga bw'imvugo n'impari, maze ahitamwo «kutagira ico amenya mu Banyakorinto kiretse Kristo, kandi Kristo yabambwe.» Yababwiye ubutumwa adakoresheje «amajambo y'ubwenge yo kwemeza abantu, ahubwo

amajambo aserukamwo Mpwemu n'ubushobozi.» 1 Ab'i Korinto 2:2, 4.

Yesu, uwo Paulo yari agiye kwereka Abagiriki i Korinto ko ariwe Kristo, yari Umuyuda yavukiye mu muryango w'abakene, yakuriye mu gisagara kirangwamwo ububi. Yari yaranswe n'abo iwabo, baruhira kumubamba nk'umunyakibi. Abagiriki bizera ko ari ngombwa gushira hejuru kiremwa-muntu, ariko bakabona ko kwiga ubumenyi n'ubuhinga ari yo nzira imwe gusa yo gushikira agateka n'icubahiro c'umuntu. Paulo yari gushobora kubasaba kwemera ko kwizera uwo Muyuda atamenyekana yari gushira hejuru kandi agahingura ubushobozi bwose bwa kiremwa? Ku bantu benshi bo muri iki gihe, umusaraba w'i Kaluvari ubibutsa ibintu vyeranda. Ibijanye n'ukubambwa birabanwa icubahiro cmshi. Ariko mu gihe ca Paulo, umusaraba warabwa nk'ikintu c'ubugesera kandi giteye ubwoba. Gushira hejuru nk'Umukiza w'abantu umuntu yapfiriye ku musaraba, vyari ngombwa ngo bamusuzugure kandi bamurwanye.

Paulo yari azi neza ingene ubutumwa bwiwe buzokwakirwa n Abayuda canke Abagiriki b'i Korinto. Yavuze ati, «Tubabarira ivya Kristo, kandi Kristo yabambwe:uyu ku Bayuda ni ikigwisha,
[128] ku banyamahanga ni ubupfu.» 1 Ab'i Korinto 1:23. Mu Bayuda bari aho harimwo benshi bari gushavuzwa n'ubutumwa yari agiye kuvuga. Ku bwo Abagiriki amajambo yiwe yari ubupfu. Yari kurabwa nk'umuntu atagira ubwenge mu kugerageza kwerekana ko umusaraba washobora gushira hejuru ikiremwa-muntu canke gukiza abantu. Ariko kuri Paulo umusaraba nico cari ikintu kiruta vyose. Na ntaryo yamye mu gikorwa ciwe atabwa muri yompi ahamwa nk'umwigishwa w'Umunyanazareti yabambwe, uwo atigeze ahengeshanya kuninahariza mu musaraba. Muri ico gihe yari yahishuriwe urukundo ntangere rw'Imana, nk'uko ruhishurirwa mu rupfu rwa Kristo; kandi ihinduka ritangaje ryari ryaraje mu buzima bwiwe, bituma mu migambi yiwe n'integuro ziwe yisunga ijuru. Kuva ico gihe yari yahindutse umuntu musha muri Kristo. Yari azi ahereye ku vyamubayeko, ko iyo umunyavyaha yitegereje urukundo rwa Data, nk'uko rugaragarira mu kwitanga k'Umwana wayo, kandi akemera guhindurwa n'Imana, aca ahinduka mu mutima, maze uhereye ico gihe Kristo akaba vyose muri bose.

Igihe yahindukirira Imana, Paulo yagize icipfuzo co gufasha abandi kwitegereza Yesu Umunyanazareti nk'Umwana w'Imana

nzima, afise ubushobozi bwo guhindura no gukiza. Kuva ico gihe, ubuzima bwiwe bwose yabuhebeye kugira akigoro ko kwerekana urukundo n'ubushobozi vya wa wundi yabambwe. Umutima wiwe wuzuye impuhwe werekeza ku bantu b'ivyiciro vyose. Yavuze ati, «Abagiriki bo n'abanyamahanga badebagura, abanyabwenge n'ibipfu, ndi n'umwenda wabo.» Abaroma 1:14. Urukundo rw'Umwami w'ubwiza, uwo yahoze na ntaryo ahama mu bera biwe, ni ryo tegeko ryagenga inyifato yiwe, n'inkomezi zamusunika. Iyo bishitse mu mwete wiwe ari mu gikorwa ciwe agacika intege, kwitegereza umusaraba n'urukundo rutangaje rwahahishuriwe, vyari bihagije kugira ngo yishiremwo akanyarigabo kandi akomeze inzira yo kwiyanka.

Raba iyo ntumwa isigura mw'isinagogi I Korinto, aharira yishimikije ivyanditswe vya Mose n'ivyo abavugishwa n'Imana, kandi agerageza kujana abamwumviriza ku kuza kwa Mesiya yasezeranywe. Umviriza ingene asobanura neza igikorwa c'Umucunguzi nk'umuherezi mukuru w'abantu-uwo, biciye mu kimazi c'ubuzima bwiwe, yategerezwa kuba rimwe gusa impongano y'icaha, hanyuma akabandaniriza igikorwa ciwe mw'ihema ryo mw'ijuru. Abumvise Paulo batahujwe ko uwo Mesiya bari bararindiriye, yari yaraje; ko urupfu rwiwe rwari igitutu c'ibimazi vyose vyatangwa mw'ihema, kandi ko igikorwa ciwe mw'ihema ryo mw'ijuru ari co kintu gitwikira ivyabaye vyose kandi kigasobanura igikorwa c'ubuherezi c'Abayuda. Paulo «yashingiye intahe Abayuda ko Yesu yari Kristo.» Yerekanye mu Vyanditswe vy'Isezerano rya Kera ko nk'uko ivyavuzwe n'abavugishwa n'Imana bo nivyo Abayuda bari biteze, Mesiya yobaye uwo mu ruvyaro rwa Aburahamu na Dawidi; aher- [129]
ako yerekana ingene Yesu akomoka ku mukurambere Aburahamu na wa mwami yanditse amazaburi. Yasomye igishingantahe cerekeye kamere n'igikorwa ca Mesiya yasezeranywe, n'ingene azokwakirwa n'uko azogirirwa kw'isi; hanyuma yerekanye ko izo mburi zose zari zarasohoye mu buzima, igikorwa, n'urupfu rwa Yesu Umunyazareti.

Paulo yerekanye ko Kristo yari yaje imbere ya vyose gutanga agakiza kw'ihanga ryose ryari ririndiriye umuzo wa Mesiya nk'intumbero n'ubwiza vyo ukubaho kwabo nk'ihanga. Ariko iryo hanga ryari ryanse kwakira Uwari kubaha ubugingo, maze bahitamwo uwundi murcmgozi, uwo amaherezo y'ubwami bwiwe ari urupfu. Yipfuza kwumvisha abamwumviriza ko kwihana kwonyene

ari kwo kwashobora gukiza ihanga ry'Abayuda uguhona kugiye
kuza. Yahishuye ko batazi ubusobanuro bw'ivyo Vyanditswe bi-
ratira kuruta ibindi, n'icubahiro batahura neza. Yabatunze urutoke
ku buryo bakunda isi, gukunda ivyicaro, ivyubahiro, kwiyerekana,
n'ukwikunda kwabo. Mu bushobozi bwa Mpwemu, Paulo yavuze
inkuru y'ingene we ubwiwe yahindukiriye Kristo, n'ukwizera afise
mu Vyanditswe vy'Isezerano rya Kera, vyari vyasohoye vyose muri
Yesu Umunyanazareti. Amajambo yiwe yayavuga yemanga, kandi
abamwumviriza vyari ngombwa ngo babone ko yakunda n'umutima
wiwe wose Umukiza yabambwe kandi akazuka. Babonye ko ub-
wenge bwiwe bwari buhanze amaso kuri Kristo, ko ubuzima bwiwe
bwose bwari bufatanye n'Umwami wiwe. Amajambo yiwe yakora
ku mutima ku buryo abanka urunuka idini rya Kristo bonyene ari bo
bashobora kudakorwa ku mutima.

Ariko Abayuda b'i Korinto bugaye amaso yabo ku vyemezo
bigaragara vyatanzwe n'iyo ntumwa, maze banka kwumviriza im-
ihamagaro yiwe. Wa mutima wari watumye bahakana Kristo,
wabujuje ishavu n'uburakari ku bwo umushumba wiwe; kandi iyo
Imana idakinga, ngo akomeze kubwira ubutumwa bwiza abanyama-
hanga, bari kumwica. «Naho babihaririye kandi barogota ku Mana,
akunkumura impuzu ziwe, arababarira, ati Amaraso yanyu araba
ari mwebwe akora. Jeho ndacuna; guhera ubu ndaja ku banyama-
hanga. Avaho, yinjira mu nzu y'umuntu yitwa Tito Yusito, yubaha
Imana, inzu yiwe yari ihereranye n'isinagogi.» Sila na Timoteyo
«bari bavuye i Makedoniya» gufasha Paulo, kandi barafatanije
gukorera abanyamahanga. Paulo na bagenziwe bamamaje BCristo
nk'Umukiza w'abantu baguye, babwira abapagani n'Abayuda. Bir-
inze kuja mu vyo impari zitoroshe z'abanyabwenge, maze izo
ntumwa z'umusaraba zibanda kuri kamere y'Umuremyi w'isi,
Segaba w'amahanga. Umutima wabo wuzuye urukundo rwTmana
n'uwo Umwana wayo, basaba abapagani kwitegereza ikimazi Imana
yatanze ku bwo agakiza k'umuntu. Batahuye yuko igihe abo bamye
[130] bazigirijwe n'umwiza w'ubupagani bobona umuco usesekara uva
ku musaraba w'i Kaluvari, bokwegera Umucunguzi. Umukiza yari
yaravuze ati, «Nanje ninamanikwa hejuru y'isi, nzokwikwegerako
bose.» Yohana 12:32.

Abo bakozi b'ubutumwa bwiza i Korinto batahuye akaga gakom-
eye gahanze iyo mitima bariko baracumukurira; berekana ukuri,

nk'uko kuri muri Yesu, bumva bafise umutwaro ku bwo abo bantu. Ubutumwa bwabo bwari butomoye kandi bugaragara-akanovera k'ubuzima gatanga ubuzima, canke akanovera k'urupfu gatanga urupfu. Ubutumwa bwiza ntibwahishurwa mu majambo gusa, ahubwo no mu buzima bwa buri musi. Abamarayika bakorana nabo kandi ubuntu n'ubushobozi bw'Imana vyaribonekeza mu guhinduka kw'abantu benshi. «Krisipo, umukuru w'isinagogi, yizera Umwami Yesu n'abo mu nzu yiwe bose; kandi n'Abakorinto benshi bumvise barizera, barabatizwa.»

Urwanko rw'Abayuda bamye banka intumwa, noneho rwarongerekanye. Ihinduka n'umubatizo wa Krisipo vyari vyazanye ingorane aho kwemeza izo ntagondwa zirwanya ubutumwa bwiza. Ntibashobora kuronka ivyiyumviro vyokuvuguruza amajambo ya Paulo, maze kubera badashobora kwiregura bahitamwo inzira y'ububeshi n'ubugizi bwa nabi. Barogota ku butumwa bwiza no kw'izina rya Yesu. Mw'ishavu ryabo rikabije, nta jambo ribi bibanga, nta buryarya bw'ubukozi bw'ikibi batinya gukoresha. Ntibashobora guhakana ko Yesu yakoze ibitangaza, ariko bavuze ko yabikoze mu bushobozi bwa Satani; maze bemanga ko ibitangaza Paulo yakoze na we nyene yabikoreshejwe na Satani. Naho kuri we vyasa n'uko vyagenze neza i Korinto, ububi yabonye kandi yumvise muri ico gisagara cibasiwemwo ububisha, vyahatswe kumuca intege. Ububi yabonye mu banyamahanga, induru n'ibitutsi vy'Abayuda vyamuteye agahinda. Yongereje ubwenge mu kugerageza kwubaka ishengero akoresheje ibikoresho yasanze aho hantu.Ubwo yariko aritegura kuva muri ico gisagara ngo aje mu murima ugendeka gusumba, kandi akagerageza gutahura neza ibanga ajejwe, Umwami yaramwiyeretse nko mu ndoto, maze avuga ati: «Ntutinye, ariko uvuge, woye gucereza: kuko ndi kumwe nawe, kandi nta muntu azogutera ngo akugirire nabi, kuko mfise abantu benshi muri iki gisagara.» Paulo yatahuye ko iryo ryari itegeko rimusaba kuguma i Korinto, kandi n'icemezo ko Umwami azokuza imbuto yabibwe. Aronka inkomezi n'intege, akomeza igikorwa n'ubwira no kwihangana.

Igikorwa ca Paulo nticabaye ico kuvugana n'abantu mu makoraniro gusa; hari abantu benshi atari gushikira muri ubwo buryo. Yamaze igihe kitari gito akora inzu ku yindi, bituma amenyana n'imiryango. Yaragendera abarwaye n'abari mu kababaro, ahumur-

iza abari mu marira, akomeza abatotezwa. Kandi mu vyo yakora vyose, yashira hejuru izina rya Yesu. Nuko rero «yakoranye intege
[131] nke, afise ubwoba kandi ahinda agashitsi kenshi.» 1 Ab'i Korinto 2:3. Yahinda agashitsi atinya ko inyigisho ziwe zogaragaramwo kamere ya kimuntu aho kurangwa na kamere y'Ubumana. «Yamara tuvugana ubwenge hagati mu batunganijwe rwose,» niko Paulo yavuze inyuma y'aho. «Ariko ubwo bwenge si ubw'iki gihe, canke ubwo abaganza b'iki gihe bagenda bayoka. Ariko tuvugishwa n'ubwenge bw'Imana bwari bwaragizwe ibanga, bwari bwaranyegejwe, ubwo Imana yagabiye kera, ibihe vyose bitarabaho ko buzoba icubahiro cacu. Kandi mu baganza b'iki gihe nta wabumenye! iyo baba barabumenye ntibaba barabamvye Umwami w'icubahiro. Ariko nk'uko handitswe ngo ivyo ijisho ritigeze kubona, n'ivyo ugutwi kutigeze kwumva, ibitigeze kwinjira mu mutima w'umuntu, vyose Imana yabiteguriye abayikunda. Ariko Imana yabiduhishuriye muri Mpwemu wayo: Mpwemu asesa vyose, n'ibihishijwe vyTmana. Ni nde mu bantu azi ibiri mu muntu, atari impwemu yiwe, iri muri we? Ni ko n'ivy'Imana biri, nta wubizi, atari Mpwemu w'Imana. Ariko tweho ntitwahawe impwemu y'iyi si, ariko twahawe Mpwemu ava ku Mana, kugira ngo tumenye ivyo Imana yaatugabiye. Na vyo nyene turabivuga, ariko ntitubivuga mu majambo yigishwa n'ubwenge bw'abantu, ariko tubivuga mu yigishwa na Mpwemu, tugereranya ivyo impwemu n'ivyo impwemu yindi.» 1 Ab'i Korinto 2:6-13.

Paulo yatahuye ko kuroranirwa kwiwe kutari guhagaze muri we, ahubwo kwari muri Mpwemu Yera, yamwuzuza umutima n'ubuntu bwiwe, iciyumviro cose kigafatwa mpiri ku bwa Kristo. Yivuzeko ati, «Imisi yose tugendana mu mubiri urupfu rwa Yesu, ngo ubugingo bwa Yesu nabwo buserukire mu mubiri wacu.» 2 Ab'i Korinto 4:10. Mu nyigisho z'iyo ntumwa, Yesu niwe yagirwa nyambere. Yavuze ati, «Ndiho, yamara si jewe nkiriho, ni Kristo ariho muri jewe.» Ab'i Galatiya 2:20. Inarije yarahishijwe; Kristo arahishurwa kandi ashirwa hejuru. Paulo yari umuntu w'imvuzi. Atarahinduka, yahora atangaza abantu ku bwo ubuhinga bw'imvugo ihinyanyuye. Ariko noneho ivyo vyose yabishize i ruhande. Aho kwisunga ubuhinga bw'imvugo ngereranyo y'abanditsi karuhariwe ariko idashobora gukora ku buzima bwa misi yose, Paulo yagerageje gukoresha imvugo yoroshe, ngo atahuze abantu ukuri kw'agaciro

ntangere. Imvugo ngereranyo iryoboye ishobora kunezereza abantu, ariko imisi yose ukuri gutanze- muri bene ubwo buryo ntibutanga imfungurwa zikenewe zozana ingoga kandi zigakomeza umwizera mu ntambara z'ubuzima. Ubukene bwa misi yose, amageragezwa y'iki gihe, imitima irwana nayo-ibi bitegerezwa gutorerwa umuti n'inyigisho ngenderwako za Kristo zikora ku buzima bw'umuntu.

Utwigoro twa Paule i Korinto ntitwabaye impfagusa: Benshi bahevye gusenga ibigirwamana, bakorera Imana Nzima, kandi ishengero rinini ryaje musi y'ibendera rya Kristo. Bamwe barokotse mu bupagani aho bari bibasiwe n'ivyaha, kandi bahinduka ivy- [132]
ibutso vy'ubuntu bw'Imana n'ubushobozi bw'amaraso ya Kristo yoza ivyaha. Ubwo Paulo yarushirije kuroranirwa mu kwamamaza Kristo, vyatumye Abayuda batizeye noneho bafata ingingo yo kumurwanya bivuye inyuma. «Bahuza inama bakurira hasi Paulo, bamuzana imbere y'intebe y'imanza»y'uwitwa Galiyo, icegera ca Kayisari muri Akaya. Bibaza ko abategetsi, nk'uko vyari vyagenze kenshi, bazobashigikira; nuko basemerera n'ishavu bidogera iyo ntumwa, bavuga ngo «Uyu mimtu yemeza abantu gusenga Imana mu buryo bunyuranye n'ivyagezwe.»

Idini ry'Abayuda ryari rikingiwe n'ubushobozi bwa Roma, kandi abarega Paulo biyumvira ko bashoboye kumuremekako icaha co guhonyanga ivyagezwe vy'idini ryabo ashobora gutererwa mu maboko yabo, bakamudedaguza kandi bakamuhana. Gutyo rero bizera ko baronka agatwe kiwe. Ariko Gahyo yari umuntu w'intungane, kandi yaranse kugwa mu mutego w'urwanko n'uburyarya bw'Abayuda. Ababazwa n'ugukavya mu vyo idini ryabo, no kwiyita abagororotsi, yanka kwakira ibirego vyabo. Paulo yiteguye kwiregura, Galiyo amubwira ko bidakenewe. Ahindukirira abo barezi buzuye ishavu, ati: «Iyo haba hari habonetse ibirego vy'icaha, canke igicumuro kigoye, yemwe Bayuda, hari kuboneka inyanduruko yuko ndabihanganira kubumva: ariko ko ari ibihari vy'amajambo n'ivyo amazina n'ivyo ivyagezwe vyanyu, ubwanyu, ni mubimare ubwanyu:jeho singomba guca urubanza rwa bene ivyo. Abirukana imbere y'intebe y'imanza. Ariko Gahyo ivyo vyose ntiyabibabara.»

Baba Abayuda canke Abagiriki bari barindiranye igishika ingingo ya Galiyo; kandi kubona yaciye ashira i ruhande urwo rubanza, nk'uko atoba yitayeho inyungu z'abanyagihugu, vyatumye Abayuda

bidohora, bashavuye babonye vyabatitukanye. Ingingo icegera ca Kayisari yafashe yuguruye amaso y'isinzi ry'abo bagumutsi bari bohejwe n'Abayuda. Ryabaye irya mbere kuva Paulo akorera mu Burayi, abona abanyagihugu baja ku ruhande rwiwe; mu maso nyene y'ico cegera ca Kayisari, kandi ata na kimwe abategetse, basimbiye kuri umwe mu bakomeye barega Paulo. «Abagiriki bose basumira kuri Sositene, umukuru w'isinagogi, bamukubitira imbere y'intebe y'imanza. Ariko Galiyo, ivyo vyose ntiyabibabara.» Gutyo Ubukristo buba buronse intsinzi ikomeye. «Paulo amarayo iyindi misi myinshi hanyuma y'ivyo.» Iyo Paulo muri ico gihe biba ngombwa ngo ave i Korinto, abizera Yesu bari kuja mu kaga gakomeye. Abayuda bari guca baboneraho akaryo, bagashika no ku rugero rwo guhonya idini rya Kristo muri ako karere.

## Ikigabane ca 25: Ivyete Ku Banyatesalonike [133]

*Iki Kigabane Gishitnikiye ku Vyete Vyandikiwe Ab'i Tesalonike*

Gushika kwa Sila na Timoteyo bava i Makedoniya igihe Paulo yari i Korinto, vyashimishije cane iyo ntumwa. Bamuzaniye «inkuru nziza» «z'ukwizera n'urukundo» rw'abari barakiriye ukuri igihe abavugabutumwa bashika i Tesalonike ubwa mbere. Paulo yagiriye impuhwe abo bizera bari bagumye ari abizigirwa ku Mana, hagati y'amageragezwa n'abansi. Yifuza kubagendera ubwiwe, ariko ntivyashoboka, nico catumye abandikira. Muri uru rwandiko kw'ishengero riri i Tesalonike, iyo ntumwa ivuga ko ishima Imana ku bwo izo nkuru zihimbaye z'uko ukwizera kwabo kwiyongera. Yanditse ati, «twaremeshejwe ku bwanyu n'ukwizera kwanyu, mu mubabaro wacu wose no mu marushwa. Kuko ubu turiho, asangwa muhagaze mu Mwami.

Ni ishimwe ki twoshobora kwishura Imana ku bwanyu, ku bwo umunezero wose tubanezererwa imbere y'Imana yacu;» dusenga cane ijoro n'umurango kugira ngo twibonanire namwe imbonankubone, tunonosore ivyasigaye ku kwizera kwanyu? «Mwese turabashimira Imana imisi yose uko dusenze, twibuka ubudasiba ibikorwa vyanyu biva ku kwizera, n'uburuhe buva mu rukundo, n'ukwihangana kuva ku kwizigira Umwami Yesu Kristo, imbere y'Imana yacu, ni yo Data wa twese.»

Benshi mu bizera i Tesalonike bari «bahevye...ibigirwamana bakorera Imana nzima kandi y'ukuri.» Bari «bakiriye ijambo ry'Imana hagati y'imibabaro myinshi;» kandi imitima yabo yuzuye «Umunezero wa Mpwemu Yera.» Iyo ntumwa yavuze ko mu gukurikira Umwami mu bwizigirwa «babaye akarorero k'abizera bose bari i Makedoniya no muri Akaya.» Aya majambo yo kubahayagiza bari bayabereye; yanditse ati «kuko muri mwebwe humvikanye ijambo ry'Umwami waacu, kandi ntiryumvikanye i Makedoniya no muri Akaya honyene, ariko ukwizera Imana kwanyu kwaramamaye hose.»

Abizera b'i Tesalonike bari abavugabutumwa nyakuri. Imitima yabo yarurumba umwete ku bwo Umukiza wabo, yari yabakijije ubwoba «bw'uburake bugiye kuza.» Biciye mu buntu bw'Umukiza, ihinduka ritangaje ryari ryabaye mu buzima bwabo, kandi ijambo ry'Umwami, ryavugwa biciye muri bo, ryarimwo ubushobozi. Imitima yaragarukiye Imana biciye mu kuri bigisha, kandi abantu benshi biyongeye ku gitigiri c'abizera. Muri uru rwandiko rwa mbere, Paulo yavuze ingene yakoze mu Banyatesalonike. Yavuze ko atarondeye guhindura abantu akoresheje ubuzimire canke ubugunge. «Nk'uko Imana yatwemeye ko turi abo kuzezwa ubutumwa, ni ko tuvuga; ntituvuga nk'abagomba kunezereza abantu, ariko
[134] nk'abagomba kunezereza Imana igerageza imitima yacu. Kuko ata na rimwe twigeze tuvuga ijambo ry'Imana dushashe akarimi, murabizi, canke ijambo ryo guhisha ukwifuza, Imana ni yo cabona c'ivyo: kandi ntitwarondera icubahiro co ku bantu, ari kuri mwebwe canke ku bandi, naho tuba twarashoboye kubaremera, kuko turi intumwa za Kristo. Ariko twaritonda hagati muri mwebwe, nk'uko umurezi abungabunga abana biwe: niko twabagirira igishika, ni co catumye duhimbarwa no kubaha, si ubutumwa bwiza bw'Imana gusa, ariko n'ubwacu bugingo na bwo, kuko mwabaye abo dukunda rwose.»

Iyo ntumwa yarakomeje iti, «mwebwe muri ivyabona hamwe n'Imana vy'ingene twamerera mwebwe abizera, turi abera, tugororoka, tutariko umugayo: nk'uko muzi ingene twari tumeze ku muntu wese muri mwebwe, nk'uko se amera ku bana biwe, tubahanura, tubaremesha, dushinga intahe, kugira ngo mugende nk'uko bibereye ab'Imana ibahamagarira kuja mu bwami bwayo no mu bwiza bwayo. «Natwe igituma dushima Imana ubudasiba, ni uko hamwe mwakira ijambo ry'Imana, mutaryemeye nk'ijambo ry'abantu, ariko nk'uko riri koko, rikorera muri mwebwe abizera.» «Ivyizigiro vyacu ni iki, canke umunezero, canke igitsibo, co mu mutwe twirata? Mbega si mwebwe, imbere y'Umwami wacu Vesu aho azozira? Kuko ari mwebwe cubahiro cacu n'umunezero wacu.»Mu rwandiko rwiwe rwa mbere ku bizera b'i Tesalonike, Paulo yarondeye kubigisha ukuri ku vyerekeye abapfuye. Vavuze ko abapfuye basinziriyenta nakimwe bazi: «Singomba ko muyoberwa ivy'abasinziriye itiro ry'urupfu, ngo ntimubabare nka ba bandi badafise ivyizigiro. Kuko, uko twizera ko Yesu yapfuye akazuka, abe ari ko twizera yuko abasinzíririye muri Yesu, Imana izobazanana na We....

Kuko Umwami wacu ubwiwe azoza, amanutse avuye mw'ijuru, aranguruye n'ijwi rirenga, hamwe n'akamo k'umumarayika mukuru, n'inzamba y'Imana: maze abapfiriye muri Kristo ni bo bazobanza kuzuka: maze natwe abazoba bakiriho, dusigaye, tuzoca duteruranwa na bo mu bicu, dusanganire Umwami mu kirere: niho tuzokwama tubana n'Umwami.»

Abanyatesalonike bari bipfuje cane gutahura iciyumviro c'uko Kristo azoza guhindura abizera bari bakiriho, ngo abajane kubana na We. Barindana ubwira ubuzima bwa bagenzi babo, kugira ntibapfe ngo batakaze imigisha bari biteze kuronka igihe Umwami wabo azozira. Ariko abakunzi babo bari bakurikiranye mu gusinzira, kandi Abanyatesalonike basezera.na agahinda abahisi babo, ata vyizigiro bafise vyo kuzobonana na bo mu buzima buzoza. Ubwo ishengero ryugurura urwandiko rwa Paulo, ryaranezerewe kandi rihumurizwa n'ayo majambo yahishura ingene abapfuye bamera vy'ukuri. Paulo yerekanye ko abazoba bakiriho igihe Yesu azozira batazotanga abasinziriye muri Yesu gusanganira Umukiza wabo. Akamo k'umumarayika mukuru n'inzamba y'Imana bizoshikira [135] abasinziriye itiro ry'urupfu, kandi abapfiriye muri Kristo bazozuka uwa mbere, imbere y'uko abazima bambikwa ukudapfa.» Natwe abakiriho dusigaye tuzoca duteruranwa na bo mu bicu, dusanganire Umwami mu kirere: niho tuzokwama tubana n'Umwami. Nuko mwiruranishe ayo majambo.»

Ntidushobora gutahura neza ivyizigiro rt'akanyamuneza ico cemezo cazaniye iryo shengero ry'umuyabaga ry'i Tesalonike. Barizeye kandi bashima urwandiko barungikiwe n'uwabavyaje ubutumwa bwiza, kandi mu mitima yabo baca baramukunda. Yari yarababwiye ivyo bintu; ariko muri ico gihe bariko bagerageza gutahura izo nyigisho zasa nk'uko ari nsha kandi zitumvikana, kandi ntibitangaje ko ibintu bimwe bimwe bitari vyashitse neza mu bwenge bwabo. Ariko bari banyotewe ukuri, kandi urwandiko rwa Paulo rwabazaniye ivyizigiro bisha n'inkomezi nsha, n'ukwizera kurushirije gushinga imizi, n'urukundo rwimbitse bakunze Uwabahaye ubugingo n'ukudapfa, biciye mu rupfu rwiwe. Baciye banezerezwa no kumenya ko abizera bagenzi babo bazozuka bakabaho ibihe bidashira mu bwami bw'Imana. Umwiza wahoze utwikiriye imva z'abapfuye, noneho wari uhavuye. Ukwizera Rukristo kwambitswe ugukayangana gusha, kandi babonye ukuninahazwa gushasha mu buzima,

urupfu n'izuka vya Yesu. «Niko n'abasinziriye muri Yesu Imana izobazanana na We,» niko Paulo yanditse. Benshi basobanura ko uyu murongo usigura ko abasinziriye bazozanana na Kristo bava mw'ijuru; ariko Paulo yashaka kuvuga ko nk'uko Kristo yazutse mu bapfuye, niko n'Imana izohamagara aberanda bakava mu mva kandi ikabajana na We mw'ijuru. Mbega amajambo y'ihumure! Atari kw'ishengero ry'i Tesalonike gusa, ahubwo no ku Bakristo bose aho boba bari hose.

Igihe yariko yandikira ab' i Tesalonike, Paulo yari yarangije neza inyigisho ivuga ibimenyetso vy'ibihe, yerekana ibintu bizobanziriza uguhishurwa kw'Umwana w'umuntu mu bicu vy'ijuru, ku buryo atabona ko bikenewe kubandikira vyinshi kuri ico kintu. Ariko yaravuze gato kuri iyo nyigisho yigishije kera. Yavuze ati, «Ivy'iyibihe n'imisi, ntimurinda kuvyandikirwa. Kuko ubwanyu murazi neza yuko umusi w'Umwami uzoza nk'igisuma kiza mw'ijoro. Aho bazoba bavuga, bati hari amahoro nta nkomanzi; niho uguhona kuzobazako giturumbuka.»Hariho benshi mw'isi uyu musi bugara amaso yabo bakiyobagiza ivyemezo Kristo yatanze agabisha abantu ku vyo kuza kwiwe. Barondera guhumuriza abantu, kandi ibimenyetso vy'iherezo vyihuta gusohora, kandi isi yiteganye igishika igihe Umwana umuntu azohishuririrwa mu bicu vy'ijuru. Paulo yigisha ko ari icaha kwirengagiza ibimenyetso bitegerezwa kubanziriza ukaruka kwa Kristo. Abagirwa n'iyi nyifato yo kwirengagiza, Paulo abita abana b'ijoro n'umwiza. Atera intege abama bagavye bakaba maso kuri aya majambo: Ariko mweho, bene Data,
[136] ntimuri mu mwiza, ngo uwo musi ububire nk'igisuma. Muri abana b'umurango: ntimuri ab'ijoro canke abo umwiza. Nuko rero ntidusinzire nk'abandi, ariko twame tugavye, twirinde ibiboreza.»Kuri iri jambo, inyigisho z'iyi ntumwa zirahambaye kw'ishengero, cane cane mu gihe cacu. Ku begereje umuhero w'isi, aya majambo ya Paulo ategerezwa kuvuganwa inkomezi: «Ariko tweho, ko turi ab'umurango, twirinde ibiboreza, twambaye icuma gikingira igikiriza c'ukwizera n'urukundo; kandi twambaye nk'inkofero ukwizigira agakiza. Kuko Imana itadushiriyeho kuturakira, ariko yadushiriyeho guheshwa agakiza n'Umwami wacu Yesu Kristo, niwe yadupfiriye kugira ngo tubeshweho nawe, twaba maso canke dusinziriye itiro ry'urupfu.»

Umukristo yama agavye ni Umukristo atareze amaboko, aronderana ishaka gukora ivyo ashoboye vyose ngo ateze imbere ubutumwa bwiza. Uko urukundo akunda Umukiza rukura, niko n'urwo akunda abandi bantu rwiyongera. Aca mu mu mageragezwa akomeye, nk'uko Umwami wiwe yayaciyemwo, ariko ntiyemerera imibabaro kumutera ishavu canke ngo bimubuze amahoro y'umutima. Arazi ko iyo amageragezwa yakiriwe neza azohingurwa kandi akamutyorora, maze akamwegereza cane Kristo. Abababarana na Kristo bazosangira na We uguhozwa kandi basangire n'icubahiro. Paulo mu rwandiko rwiwe arabandanya ati, «Turabinginga bene Data, mumenye abakora muri mwebwe bakaruha, babaganza mu Mwami wacu, bakababahanura, mububahe rwose mu rukundo ku bwo igikorwa cabo. Mubane amahoro.»

Abanyatesalonike bari barambiwe n'abantu babazanira ivyiyumviro n'inyigisho zo gukavya. Bamwe «basaragurika, badakora na gato... bita mu bitabakwiye.» Ishengero ryari ryaratunganijwe neza, kandi abarongozi bari baratowe ngo bakore nk'abavugabutumwa n'abarongozi b'ishengero. Ariko harimwo bamwe bigenga, batwarira hejuru, bagarariza abashizwe mu bibanza nk'abaganza mw'ishengero. Ntibavuga gusa ko bakeneye uburenganzira bwo kwigenga mu vyiyumviro, ahubwo mbere bavuga ko bafise n'uburenganzira bwo kutegeka ishengero kugendera ku vyiyumviro vyabo. Paulo abibonye, yasavye Abatesalonike kwubaha n'ukugamburukira abatowe kuba abarongozi mw'ishengero. Kubwo kwitwararika abizera b'i Tesalonike bagendera mu kwubaha Imana, iyo ntumwa yabinginze kugaragaza ubweranda mu buzima bwa misi yose. Yanditse ati, «Bene Data, turabinginga, kandi turabahanura mw'izina ry'Umwami Yesu, nk'uko mwize kuri twebwe ingene mukwiye kugenda no kunezereza Imana, murushirize kugenda mutyo. Murazi ivyagezwe twahawe n'Umwami Yesu. Ico Imana igomba, n'ukwezwa kwanyu, ko mwirinda ubusambanyi.» «Kuko Imana itaduhamagariye guhumana, ariko yaduhamagariye kwezwa.»

Iyo ntumwa yumva ko ifise uruhara runini mu buzima bwiza mu [137]
vya Mpwemu bw'abahindukiriye Imana ku bwo ibikorwa vyiwe.Ico yabifuriza kwari uko bakura mu kumenya Imana y'ukuri, na Yesu Kristo Uwo yatumye. Kenshi mu gikorwa ciwe yahura n'utugwi tw'abagabo n'abagore bakunda Yesu, kandi agapfukamana nabo

agasenga, asaba ko Imana ibigisha ingene boguma mu bumwe n'Imana. Kenshi yaraja inama nabo, bakiga uburyo bubereye neza bwo gushikiriza abandi umuco w'ubutumwa bwiza bw'ukuri. Kandi kenshi, iyo atandukanye n'abo yahaye ubutumwa, yinginga Imana ngo ibarinde ikibi kandi ibafashe kuba abavugabutumwa b'umwete. Kimwe mu bimenyetso yabahaye bigaragaza ko umuntu yahindutse vy'ukuri, ni ugukunda Imana n'abantu. Abakira Yesu nk'Umukiza, bakunda abandi ata buryarya, bikaba icemezo c'ukwizera nyakuri. Uku niko vyari bimeze ku Banyatesalonike. Ku vyo gikunda abene Data, iyo ntumwa yanditse iti,«ariko ivyo gukunda bene Data ntimurinda kuvyandikirwa, kuko ubwanyu mwigishijwe Imana gukundana; kandi ni ko nyene mugiriranira na bene Data bose b'i Makedoniya hose: ariko bene Data turabahanura ngo murushirize kugira urukundo rwinshi; kandi mushishikare kwiyorosha, no gukora ivyanyu, no gukoresha amaboko yanyu, nk'uko twababariye; kugira ngo mugendane ingeso nziza ku bo hanze, kandi mutagira ico mukenye.»Namwe Umwami wacu abagwirize, abasagirize urukundo mukunda abandi bose, nk'uko natwe tumeze kuri mwebwe: kugira ngo aremeshe imitima yanyu, ntigire umugayo, ibe iyera imbere y'Imana yacu, niyo Data wa twese, ize isangwe ityo aho Umwami wacu Yesu azozananira n'abera biwe bose.» «Kandi turabahanura, bene Data, muhubure abasaragurika, muremeshe abarandutse imitima, muramire abanyantege nke, mwihanganire bose. Mwirinde ntihagire umuntu yihora uwundi ikibi yamugiriye, ariko mwame mukurikira iciza mu vyo mugiriranira no mu vyo mugirira abandi bose. Munezerwe imisi yose; musenge ubudasiba; mwame mukenguruka muri vyose, kuko ico ari co Imana ibagombako muri Kristo Yesu.»

Iyo ntumwa yahanuye Abanyatesalonike kudakengera ingabire y'abavugishwa n'Imana: «Ntimukazimye Mpwemu; ntimugakengere ivyo abavugishwa n'Imana; mugerageze vyose, mugumye ivyiza, mwirinde icitwa igisa n'ikibi cose;» kandi aheraheza uru rwandiko rwiwe asaba Imana ko ibeza rwose, ngo «muri mpwemu, mu bugingo no mu mubiri «bazigamwe, ngo baze basangwe batagira umugayo, aho Umwami wacu Yesu azozira. Iyabahamagaye ni iyo kwizigira,» yongerako ati, «no kubikora izobikora.»Impanuro Paulo yarungikiye Ab'i Tesalinike mu rwandiko rwiwe rwa mbere ku vyerekeye ukugaruka kwa Kristo, zari zihwanye n'inyigisho yari

yarabashikirije imbere y'aho. Ariko amajambo yiwe hari bene Data bamwe b'i Tesalonike bayatahuye nabi. Batahuye ko yavuze ngo [138] yizigiye ko azoba we ubwiwe ari muzima ngo abone ukugaruka kw'Umukiza wiwe. Uku kwizera kwongereje umunezero n'igishika cabo. Abari barigize basindabibazwa kandi bakirengagiza amabanga bajejwe, baciye batsimbatara mu vyiyumviro vyabo bigoramye.

Mu rwandiko rwiwe rwa kabiri Paulo yagerageje gukosora uko gutahura kwabo kudatomoye kw'inyigisho ziwe, no kubereka aho ahagaze vy'ukuri. Yongeye kwerekana ko yizigiye ko ari abantu b'intungane, no kubakengurukira ku kwizera kwabo gukomeye, kandi ko bakundana, bagakunda n'igikorwa c'Umwami wabo. Yabamenyesheje ko yabatanzeko akarorero mu yandi mashengero, nk'abantu bafise ukwizera, bihangana, bakaba abagabo mu kwihanganira agahamo n'imibabaro, kandi yerekeza ubwenge bwabo ku gihe co kugaruka kwa Kristo, aho abantu b'Imana bazoruhuka imyitwarariko n'ingorane zabo zose. Yanditse ati, «Nico gituma ubwacu tubirata mu mashengero y'Imana, kubwo kwihangana kwanyu n'ukwizera mu guhamwa kwanyu kwose n'amagorwa mushinyiriza» ... «no kwishura mwebwe abayaterwa kuruhukana natwe, aho Umwami Yesu azohishurirwa, ava mw'ijuru, azananye n'abamarayika n'ubushobozi bwiwe».... «nico gituma tubasengera imisi yose, ngo Imana yacu ibemere ko mumeze nk'uko bibereye ihamagarwa ryanyu, kandi ishikishe ubushobozi ico munezererwa ciza cose n'igikorwa canyu cose kiva ku kwizera: kugira ngo izina ry'Umwami wacu Yesu rishimagizwe muri mwebwe, namwe mushimagizwe muri We, nk'uko ubuntu bw'Imana yacu n'ubw'Umwami Yesu Kristo buri.»

Ariko imbere yo kugaruka kwa Kristo hategerezwa gushika muri iyi si ibintu bihambaye, vyabuwe n'amajambo y'abavugishwa n'Imana. Iyo ntumwa yavuze iti: «Ntimushoke munyiganyiga ngo mugwe igihumura, canke ngo muhagarike imitima, naho mwoba mubitewe n'impwemu canke amajambo canke n'urwandiko rumeze nk'uruvuye kuri twebwe, ruvuga yuko umusi w'Umwami wacu uhejeje gushika. Ntihagire umuntu abahenda mu buryo na bumwe: kuko utazoza, kwa kureka Imana kutabanje kuboneka, kandi wa muntu w'umugarariji atarahishurwa, ni we mwana wo kuranduka, umurwanizi yishira hejuru y'icitwa Imana cose canke igisengwa; nuko azokwicara mu rusengero rw'Imana, yiyerekana ngo ni Imana.»

Amajambo ya Paulo ntiyategerezwa gusobanurwa ukutari kwo. Ntibashobora kwigishwa ko kubwo uguhishurirwa kudasanzwe yari yagabishije Ab’i Tesalinike ko Kristo agiye kuza muri ako kanya nyene. Iciyumviro nk’ico cari gutuma abantu bazazanirwa mu kwizera kwabo; kuko kenshi gucika intege bivyara kutizera. Iyo ntumwa rero yagabishije bene Data ngo ntibakire ubutumwa bene ubwo nk’uko bwoba buvuye iwe, maze aca ashirako akatuzo avuga ko, ubushobozi bwa Gipapa bwavuzwe neza n’uwavugishwa n’Imana Daniyeli, butari bwashike ngo burwanye abantu b’Imana.
[139] Ubwo bushobozi butarashira mu ngiro igikorwa cabwo c’ubwicanyi no kurogota ku Mana, ishengero ryoruhiye ubusa ngo ririndiriye ko Umwami agaruka. Paulo yababwiye ati, «Ntimwibuka ko nababwiye ivyo nkiri kumwe namwe? Amageragezwa ateye ubwoba yategerezwa gushikira ishengero nyakuri. No mu gihe intumwa yariko irandika, «ibanga ry’umugararizo» ryari ryaratanguye gukora. Ibizoshika mu misi iri imbere bizoshika «Satani amaze gukora n’inkomezi n’ubushobozi bwose bw’ibimenyetso, n’ibitangaza vy’ibinyoma, n’ubugunge bwose bwo kugabitanya ku bahona.»

Ku buryo bw’umwihariko, iyo ntumwa yavuze amajambo ahambaye ku bantu batazokwemera «gukunda ivyo ukuri.» Yavuze ati «Ni co gituma» ku bwo abo bose bazohakana bemanze ubutumwa bw’ukuri «Imana ibarungikira ubuzimire bubakoreramwo, ngo bizere ibinyoma: kugira ngo abatizeye ukuri bose, bagahimbarirwa ukugabitanya bacirweko iteka.» Abantu ntibashobora gutera umugongo impanuro Imana mu buntu bwayo ibarungikiye ngo babure kuzobihanirwa. Abakomantaza umutima bakanka izo mburi, Imana ibakurako Mpwemu wayo, bagakurikira ibinyoma bakunda.

Gutyo rero Paulo yaberetse ububi bw’ico gikorwa c’ubushobozi bw’ikibi, bwategerezwa kubandanya mu binjana vy’umwiza n’agahamo imbere yo kugaruka kwa Kristo. Abizera b’i Tesalonike bari bizeye ko bazobohorwa bidatevye; none basabwe kwihangana no gukora mu kwubaha Imana n’igikorwa kiri imbere yabo. Iyo ntumwa yabasavye kudafata minenerwe ibikorwa bajejwe canke ngo barindire bareze amaboko. Inyuma y’ico gishika bari barindiranye gutabarwa, ingorane z’ubuzima n’abansi vyari bibarindiriye vyabasaba kwongereza ukwihangana incuro zibiri. Niyo mpamvu yabahanuye ngo bashikame mu kwizera:

Nuko mushikame, mugumye ivyo mwigishijwe, ari ivyo mwigishirijwe mu majambo canke mu rwandiko rwacu. Ariko, Umwami wacu Yesu Kriso ubwiwe, n'Imana Data wa twese, yadukunze, ikaduha kwirurwa imibabaro guhoraho, bo n'ivyizigiro vyiza biheshwa n'ubuntu bwayo, ibirure mu mitima yanyu, iyikomeze mu gikorwa cose ciza, n'ijambo ryose ryiza.» «Ariko Umwami ni uwo kwizigirwa, ni we

azobabashinga neza abarinde wa Mubi.Kandi twizigiye Umwami ku bwanyu, yuko ivyo tugeze mubikora kandi muzokwama mubikora. Umwami arongore imitima yanyu, ayerekeze ku rukundo rw'Imana no ku kwihangana kwa Kristo.» Igikorwa c'abizera bari bagihawe n'Imana. Kubera bari bakiriye ukuri basabwa gushira abandi umuco bari barahawe. Iyo ntumwa yabinginze ngo ntibaruhe mu gukora ivyiza, kandi abaha akarorero kiwe ko kwitwararika ivyo ubu bugingo igihe yakora atiziganya mu gikorwa ca Kristo. Yihanikirije abantu bagenda basaragurika, bama bineganegera, maze abahanura ko «bokora ibikorwa batekereje, no kurya

[140] ivyo bironkeye ubwabo.» Yasavye kandi ishengero kwitandukanya n'umuntu wese akomeza kutumvira impanuro zitangwa n'abakozi b'Imana. Yongeyeko ati «ariko ntimumwiyumvire ko ari umwansi wanyu, ariko mumuhanure nka mwene So. Uru rwandiko kandi Paulo yarurangirije asaba ko hagati y'imiruho n'amageragezwa amahoro y'Imana n'ubuntu bw'Umwami Yesu Kristo vyobirura kandi bikabashigikira.

# Ikigabane ca 26: Apolo I Korxnto

*Iki Kigabane gishimikiye ku Vyakozive n'Intwmva 18:18-28.*

Amaze kuva i Korinto, ahandi hantu Paulo yakoreye ni muri Efeso. Yari mu rugendo atumbera i Yerusalemu guhimbaza umusi mukuru wari wimirije kuba, kandi umwanya yamaze muri Efeso wategerezwa kuba muto. Yahaririye n'Abayuda mw'isinagogi, kandi amajambo yiwe yabakoze ku mutima ku buryo bamusavye ngo abandanye gukorera muri bo. Umugambi wiwe wo kugendera Yerusalemu wamubujije kuhateba, ariko yabasezeraniye ko azosubira kubaraba, «Imana niyabikunda.» Akwila na Purisikila bari bamuherekeje i Efeso, maze abasigayo ngo aje gukora igikorwa yari yaratanguye. Ni muri ico gihe «Umuyuda yitwa Apolo, amamuko yiwe ni muri Alekisanderiya, yari umuntu w'ubwenge, ashika muri Efeso.» Yari yarumvise inyigisho za Yohana Umubatizi, abatizwa umubatizo wo kwihana, kandi yari icabona kizima ko igikorwa c'uwo muvugishwa n'Imana kitabaye impfagusa.Ivyanditswe vyera bivuga kuri Apolo ko «yari yigishijwe inzira y'Umwami wacu, acanirwa mu mutima n'umwete, yavuga yigisha ivya Yesu avyitondeye, yari azi umubatizo wa Yohana gusa.»

Igihe yari i Efeso, Apolo «atangura kuvuga mw'isinagogi ashize amanga.» Mu bamwumvirije harimwo Akwila na Purisikila, babonye ko atararonka umuco wose w'ubutumwa bwiza, «bamujana i wabo, barushiriza kumutahuza inzira y'Imana.» Mu nyigisho zabo yatahukiwe neza Ivyanc'.itswe Vyera kandi aba umwe mu barwanira ukwizera Rukristo.

Apolo yarifuza kujabuka muri Akaya, maze bene Data b'i Efeso «bandikiva abigishwa ngo bamwakire» nk'umwigisha yuzuye mu vyo ishengero rya Kristo. Yagiye i Korinto, aho yakoreye ku mugaragaro n'urugo ku rundi, «atururuza Abayuda... abereka mu vyanditswe yuko Yesu ari we Kristo.» Paulo yari yabivye imbuto y'ukuri, Apolo nawe arayivomera. Intsinzi Apolo yagize mu kwigisha ubutumwa bwiza, yatumye abizera bamwe bashira hejuru ibikorwa

vyiwe babirutisha ivya Paulo. Iri higanishwa ry’ umuntu n’uwundi ryazanye mw’ishengero agatima ko kwirema ibice katumye igikorwa c’ubutumwa bwiza gisubira inyuma cane.

Mu kiringo c’umwaka n’igice Paulo yamaze i Korinto, yabigize ibigirankana yigisha ubutumwa bwiza mu buryo bworoheje cane, ntiyaje mu Bakorinto «ari agakura mu majambo canke ubwenge; ahubwo yabanye nabo afise intege nke n’ubwoba, ahinda agashitsi, kandi «yashingiye intahe Imana» «mu mvugo yaserutsemwo Mpwemu n’ubushobozi,» kugira ngo ukwizera kwabo «ntiguhagarare mu bwenge bw’abantu, ariko guhagarare mu bushobozi bw’Imana.» 1 Ab’i Korinto 2:1, 4, 5. Paulo vyabaye ngombwa ko inyigisho yiwe yisunga imibereho y’ishengero. «Kubwanje, bene Data, sinashoboye kubabwira nk’ ab’impwemu,» hanyuma yabasiguriye ati «ariko nababwiye nk’abaganzwa na kameremere k’imibiri yabo, nk’abana b’inzoya bo muri Kristo. Nabaramije amata, sinabagaburiye ivyo kurya bigumye: kuko mutari bwabishobore. Kandi na none ntimurabishobora.» 1 Ab’i Korinto 3:1,2. Benshi mu bizera b’i Korinto bari batahuye buhoro buhoro inyigisho yagerageje kubigisha. Ugukura kwabo mu vya Mpwemu ntikwajanye n’uburyo n’amahirwe bari bafise. Aho bari kuba bageze kure mu buzima Rukristo, maze bagashobora gutahura no gushira mu ngiro ukuri kwimbitse kw’ijambo ryTmana, bahagaze hamwe abigishwa bari igihe Yesu yababwira ati, «Nari ngifise vyinshi vyo kubabwira, ariko ntimushobora kuvyihanganira ubu.» Yohana 16:12. Ishari, ukwikekana, n’ukuregana vyari vyarugaye imitima ya benshi mu Banyakorinto bibuza igikorwa cuzuye ca Mpwemu Yera, «asesa vyose, n’ibihishijwe vyTmana.» 1 Ab’i Korinto 2:10. Naho bari abanyabwenge mu vy’isi, bari bakiri inzoya mu bumenyi bwa Kristo. [141]

Cari igikorwa ca Paulo kwigisha abizera b’i Korinto ibintu vyoroheje vy’inyigisho z’intango z’ukwizera Rukristo. Vyari vyabaye ngombwa ngo abigishe nk’abataco bazi ku vyerekeranye n’ubushobozi bw’Imana ku mutima. Muri ico gihe ntibashobora gutahura amabanga y’agakiza; kuko «umuntu afise umubiri n’ubwenge gusa ntiyemera ivya Mpwemu w’Imana: kuko ari ubupfu kuri we, kandi ntashobora kubimenya, kuko vyitegerezwa mu buryo bw’impwemu.» Umurongo wa 14. Paulo yari yagerageje kubiba imbuto, iyo abandi nabo bazovomera. Abamukurikiye bategerezwa

kubandanya igikorwa aho yakigejeje, bagatanga umuco wa Mpwemu n'ubwenge mu gihe kibereye, uko ishengero ryoshobora kuwakira.

Igihe iyo ntumwa yatangura igikorwa i Korinto, yatahuye ko ategerezwa kwitonda mu kwinjiza inyigisho zihambaye yari agendereye kwigisha. Yari azi ko mu bamwumviriza hazobamwo abizera bishira hejuru ku bwo inyigisho z'abantu, n'abigisha uburyo butari bwo bwo gusenga, barondera nk'impumyi, bizeye ko mu bitabu vy'inyigisho z'ibidukikije bosangamwo amajambo yo kuvuguruza ukuri kw'ivya Mpwemu n'ubugingo budashira nk'uko
[142] bihishurwa mu Vyanditswe Vyera. Yari azi kandi ko hazoba ibihari vy'abogerageza kuvuguruza ubusobanuro Rukristo bw'ijambo ryahishuwe, kandi ko ba ntibanyurwa bazosuzugura ubutumwa bwiza bwa Kristo, bakabutwenga.

Ubwo yagerageje kuzana imitima ku birenge vy'umusaraba, Paulo ntiyigerejeko mu gukankamira imbona nkubone abantu b'ingeso mbi, canke ngo yerekane ingene icaha ari igisesema imbere y'Imana Yera. Ahubwo, yashize imbere yabo intumbero nyakuri y'ubuzima, kandi agerageza gushimangira mu bwenge bwabo inyigisho za wa Mwigisha yavuye ku Mana, zimwe iyo zakiriwe, zizobavana mu vyiyummviro vy'isi n'icaha, zikabajana ku bweranda n'ubugororotsi. Yashize cane akatuzo ku kwubaha Imana mu buzima bwa misi yose, n'ubweranda abazemerwa nk'ababereye ikibanza mu bwami bw'Imana bategerezwa gushikako. Yipfuje kubona umuco w'ubutumwa bwiza bwa Kristo utobekeranya umwiza w'ivyiyumviro vyabo, ngo batahure ingene ibikorwa vyabo vy'ubushirasoni bibabaza Imana. Umutwaro rero w'inyigisho ziwe muri bo yari Kristo, kandi Kristo yabambwe. Yagerageje kubereka ko ico bokwihatira kwiga kuruta ibindi kandi vyobazanira umunezero, ari ukuri gutangaje kw'agakiza biciye mu kwihana imbere y'Imana no mu kwizera Umwami Yesu kristo. Umunyabwenge atera umugongo umuco w'agakiza, kuko utetereza ivyiyumviro vyiwe vy'ubwibone; umuntu w'isi yanka kuwakira, kuko wohava ubatandukanya n'ibigirwamana vyiwe vy'isi. Paulo yatahuye ko ari ngombwa kamere ya Kristo itahurike imbere y'uko abantu bamukunda canke barabisha umusaraba ijisho ry'ukwizera. Aha ni ho hategerezwa gutangurira icigwa kizoba ubumenyi n'indirimbo y'abacunguwe mu bihe bidashira. Mu muco w'umusaraba niho honyene dushobora kubona agaciro k'umutima w'umuntu.

Igikorwa c'ubuntu bw'Imana gihingura umuntu gihindura ivyiyumviro vya kimuntu. Umuntu w'inyama n'amaraso ntiyokwipfuza ijuru; ivyipfuzo vyiwe vy'umubiri, imitima itejejwe ntiyokwegakwegwa n'ikibanza kitanduye, cera, kandi naho vyoba vyoshoboka kubareka bakinjira, ntibosangayo ikintu na kimwe kibashimisha. Ivyifuzo bitegeka umutima wa kamere y'umubiri bitegerezwa gucishwa bugufi n'ubuntu bwa Kristo imbere y'uko umuntu yaguye abera kwinjira mw'ijuru n'ukunezerezwa no kubana n'abamarayika bera, batagira agasembwa. Iyo umuntu apfuye ku caha kandi akakira ubugingo busha muri Kristo, urukundo rw'Imana rwuzura umutima wiwe; ugutahura kwiwe kukezwa; anywa kw'isoko idakama y'umunezero n'ubumenyi, kandi umuco w'umusi udashira ugakayanganira mu nzira yiwe, kuko abana ibihe vyose n'Umuco w'ubugingo.

Paulo yipfuza kwumvisha bene Data b'i Korinto n'abo basangiye igikorwa bari bahamagawe n'Imana kwigisha ukuri, ko bose bakora igikorwa kimwe, kandi ko bose bisunga Imana kugira ngo baroranjrwe mu bikorwa vyabo. Impari zari zavyutse mw'ishengero ku [143] vyerekeye abakoze vyinshi kuruta abandi mu kuvuga ubutumwa ntizari zavuye ku Mana, ahubwo zari zavuye ku gatima ka kamere y'umubiri. «Umuntu umwe ko avuga, ati jeho ndi uwa Paulo; uwundi ati, jeho ndi uwa Apolo, ntimuri abantu se? None Apolo ni iki? Kandi Paulo ni iki? Mbega si abakozi batumye mwizera Imana, nk'uko Imana yahaye umuntu wese? Ni jewe nateye imbuto, Apolo arazivomera, ariko Imana ni yo yazikujije. Nuko uwuzitera ntaco amaze, canke uwuzivomera, atari Imana ikuza.» 1 Ab'i Korinto 3:4-7. Ni Paulo yari yavuze ubutumwa bwiza i Korinto, kandi akahashinga inzego z'ishengero. Iki ni igikorwa Imana yari yamuhaye gukora. Inyuma y'aho, barongowe n'Imana, abandi bakozi barinjijwe mu gikorwa, bakora uruhara rwabo. Imbuto yatewe itegerezwa kuvomererwa, kandi iki ni co gikorwa Apolo yakoze. Yakurikiye Paulo mu gikorwa ciwe, ngo atange izindi nyigisho, kandi ngo afashe gukura imbuto yatewe. Yateye imbuto mu mitima y'abantu ariko, Imana ni yo yayihaye ububasha bwo gukura. Ntabwo ari umuntu, ahubwo ni ubushobozi bw'Imana buhindura kamere. Abatera canke abavomera si bo bashoboza imbuto kumera; bakora bisunze Imana, nk'ibikoresho yitoranirije, bakorana na yo mu gikorwa cayo. Mwene

igikorwa ni we akwiriye icubahiro n'ubwiza ku bwo intsinzi ibonetsee.

Abasuku b'Imana ntibafise ingabire zisa, ariko bose n'abakozi bayo. Umwe wese ategerezwa kwigira ku Mwigisha Mukuru, maze akigisha abandi ivyo yize. Imana yahaye umwe wese wo mu ntumwa zayo igikorwa yiharije. Hari ingabire nyinshi, ariko abakozi bose bategerezwa gukorera mu bumwe, barongowe n'ubushobozi bwera bwa Mpwemu Yera. Ubwo bamenyekanisha ubutumwa bwiza bw'agakiza, benshi baremera kandi bagahindukirira Imana ku bwo ubushobozi bwayo. Umuntu nk'igikoresho ahishijwe hamwe n'Imana muri Kristo, kandi Kristo agaragara nka kizigenza hagati y'ibihumbi cumi, umwe w' igikundiro. «Uwuzitera n'uwuzivomera ni bamwe: ariko umuntu wese azogererwa nk'uko yakoze igikorwa ciwe. Kuko Imana ari yo dukorana, namwe muri indimiro y'Imana, muri inzu yubakwa n'Imana.» Imirongo 8,9. Muri iyi mirongo Paulo agereranya ishengero n'umurima warimwe, abakozi bakitwararika inzabibu z'umurima w'Umwami; arigereranya kandi n'inyubako, itegerezwa gukura igahinduka ingoro yera y'Uhoraho. Imana ni yo nyene Mukoresha, kandi yahaye umuntu wese igikorwa ciwe. Bose bategerezwa gukora bamwisunze, bakamureka akabakorera kandi agakorera mu bakozi biwe. Abaha ubwenge n'ubukerebutsi, kandi bakurikije inyigisho ziwe, aha intslnzi utwigoro twabo.

Abasuku b'Imana basabwa gukorera hamwe, bafatanya mu bugwaneza, urupfasoni n'urutonde, ku vyo icubahiro, umuntu wese ashire imbere mugenzi we.» Abaroma 12:10. Ntihakabe kuvuga
[144] abandi kutarimwo urukundo, gusambura igikorwa c'uwundi; kandi ntihakabe ukwiremamwo ibice. Umuntu wese Umwami yahaye ubutumwa afise igikorwa ciwe kimwega. Umwe wese arisa, kandi ntashobora gusa n'uwundi muntu. Ariko kandi umwe umwe wese ategerezwa gukorera hamwe na bene Data. Mu gikorwa cabo, abakozi b'Imana basabwa kuba umwe. Nta n'umwe ategerezwa kwishira hejuru y'abandi, akengera abo bikorana canke abafata nk'abari musi yiwe. Umwe wese ategerezwa gukora igikorwa yashinzwe arongowe n'Imana, akubahwa, agakundwa, kandi agafatwa mu mugongo n'abo bikorana. Bose hamwe basabwa gukora ngo barangize igikorwa.

Izi ngingo nyobozo Paulo arazishirako akatuzo mu rwandiko rwiwe rwa mbere kw'ishengero ry'i Korinto. Paulo avuga «abavuga

butumwa ba Kristo» nk' «abajejwe amabanga y'Imana,» kandi kubwo igikorwa cabo avuga ati: «Abazezwabintu babagombako ko baboneka ari abizigirwa. Ariko ku bwanje, ni nk'ubusa rwose gucirwa urubanza namwe, canke n'urukinja rw'abantu: kandi nanje nyene sinicira urubanza. Kuko ata co niyiziko, ariko si ico kuntsindishiriza: ariko uwuncira urubanza ni Umwami wacu. Ni co gituma mudakwiye guca urubanza rw'ikintu na kimwe igihe carwo kitarashika, nico kuza kw'Umwami wacu, azomurika ivyari vyanyegejwe mu mwiza, kandi azogaragaza inama zo mu mitima: ni ho umuntu wese azohabwa n'Imana ishimwe 1 imukwiye.» 1 Ab'i Korinto 4:1-5. Nta muntu n'umwe yahawe uburenganzira bwo gucira imanza abasuku batandukanye b'Imana. Umwami wenyene ni We ashobora gucira urubanza igikorwa c'umuntu, kandi azoha umwe umwe wese ingororano yiwe. Iyo ntumwa, ibandanije, yavuze ku ngereranyo zari zagizwe hagati y'ibikorwa vyayo n'ivya Apolo: irabandanya ivuga iti «Ariko, bene Data, ivyo mvyigeranijeko, jewe na Apolo, ku bwanyu, nk'igishushanyo: kugira ngo ivyo mvuze kuri twebwe bibigishe kutarenga ivyanditswe; ntihagire umuntu yikakisha arwana ishaka ry'umwe akagaya uwundi. Ni nde aguteye kwitandukanya n'abandi? Kandi ico ufise utahawe ni igiki? Ariko namba waragihawe, ni igiki gituma wirata, nk'uwutagihawe?» Imirongo 6, 7. Paulo yeretse ishengero akaga n'imiruho we n'abo bikorana bihanganiye mu gikorwa ca Kristo. Yavuze ati, «Gushitsa n'ubu, twishwe n'inzara n'inyota, twambaye ubusa, dukubitwa ibipfunsi, tubura uburagamo, dukoresha amaboko yacu tukaruha: iyo badutuka turabahezagira, iyo baduhama turihangana, iyo batwambika ibara turabahoyahoya. Twahindutse umwavu w'isi, n'udukokorwa kuri bose gushitsa n'ubu. Ivyo sindabibandikiye kubatetereza, ariko ni nko kubahanura, nk'abana banje nkunda. Kuko naho mufise muri Kristo ababarera ibihumbi cumi, ntimufise ba so benshi, kuko ari jewe nabavyaje ubutumwa bwiza muri Kristo Yesu.» Imirongo 11-15.

Uwurungika abakozi b'ubutumwa bwiza nk'ivyariho vyiwe [145]
akorwa n'isoni iyo habonetse mu bumviriza ijambo ryabo gukundwakaza umuvugabutumwa umwe n'ukwirengagiza ibikorwa vy'uwundi mwigisha runaka. Imana irungikira ubufasha abantu bayo, atari nk'uko bavyifuza, ariko iravye ivyo bakeneye; kuko abantu babona hafi kandi ntibashobora gutahura ikibabereye ciza

kuruta ibindi. Ntivyoroshe ko umuvugabutumwa ashobora kugira impano zose zikenewe zo gushikana ishengero ku rugero ruhagije mu vyo rikeneye vyose vya Gikristo; ni co gituma kenshi Imana ibarungikira abandi bavugabutumwa, umwe wese akaba afise ingabire zibuze mu wundi. Ishengero ryari rikwiye kwakirana ishimwe abo basuku ba Kristo, nk'uko bokwakira Umwami ubwiwe. Bakwiye kubona inyungu mu nyigisho yise umuvugabutumwa wese abashikirije ivuye mw'ijambo ry'Imana. Ukuri abasuku b'Imana bazanye gukwiriye kwakirwa kandi kugashimwa mu kwicisha bugufi, ariko nta muvugabutumwa akwiriye kugirwa ikigirwamana.

Ku bwo ubuntu bwa Kristo, abavugabutumwa b'Imana bagirwa intumwa z'umuco n'umuhezagiro. Ubwo bashishikarira mu masengesho, baronka inkomezi za Mpwemu Yera kandi bakagenda batwaye umutwaro wo gukiza imitima, imitima yuzuye ubwira bwo kwagura intsinzi y'umusaraba, bazobona icamwa c'ibikorwa vyabo. Mu guhitamwo kwanka kwerekana ubwenge bwabo canke kwishira hejuru, bazokora igikorwa kizorinda imyampi ya Satani. Imitima myinshi izovanwa mu mwiza ije mu muco, kandi amashengero menshi azoshingwa. Abantu bazohindukirira Imana, ntibazohindukirira abantu Imana yakoresheje, ahubwo bazohindukirira Kristo. Inarije izokwigizwa inyuma; Kristo gusa, Wa muntu w 'i Kaluvari, azoseruka. Abo bakorera Kristo uyu musi, barashobora kwerekana ingeso zidasanzwe mwene izo, zagaragaye mu bamamaje ubutumwa bwiza mu gihe c'intumwa. Imana yiteguye uyu musi guha ubushobozi abasuku biwe nk'uko yabuhaye Paulo na Apolo, Sila na Timoteyo, Petero, Yakobo na Yohana.

Mu gihe c'intumwa hari abantu bamwe bazimiye bibwira ngo bizera Kristo, ariko bakanka kwubaha Ivyariho vyiwe. Bavuga ko badakurikira umwigisha w'umuntu, ngo bobo biyigishirizwa na Kristo ubwiwe bidaciye ku bufasha bw'abakozi b'ubutumwa bwiza. Bari banyamwigendako mu vyiyumviro vyabo kandi ntibashaka kwumvira ijwi ry'ishengero. Abantu nk'abo bari mu kaga gakomeye ko guhendwa. Imana yashinze mw'ishengero, nk'abafasha bayo, abantu b'ingabire zitandukanye, kugira ngo biciye mu bwenge bw'abantu benshi ishikire imitima. Abantu bakora bisunze inkomezi zabo za kamere bakanka gukorana n'abandi bababoneye izuba mu gikorwa c'Imana, bazohinduka impumyi kubwo gushira ivy-

izigiro muri bo, ntibashobore gutandukanya ukuri n'ikinyoma. Abantu nk'abo ntibabereye kuba abarongozi mw'ishengero; kuko [146] bohava bakurikira ivyiyumviro vyabo n'imigambi yabo, batifayeho ivyiyumviro vya bene Data. Birorohera umurwanizi gukorera muri abo bantu, bo ubwabo bakeneye guhanurwa kuri buri ntambwe batera, hanyuma bakigira abarinzi b'imitima mu nkomezi zabo, batize ukwicisha bugufi kwa Kristo. Ibiboneka inyuma ku maso ntibihagije kuyobora umuntu mu gikorwa. Umurwanizi kenshi yemeza abantu kwizera ko Imana iriko irabayobora, kandi mu vyo ukuri bariko barakurikira ibisunitswe na kamere y'umuntu. Ariko tubaye maso, kandi tugasaba inama bene Data, tuzotahura ubugombe bw'Umwami; kuko isezerano ari, «Abicisha bugufi azobarongora mu vyo ukugororoka, abicisha bugufi azobarangira inzira yiwe.» Zaburi 25:9.

Mw'ishengero rya Kristo rya mbere hariho abantu banka kwemera Paulo canke Apolo, ariko bakemera ko Petero ari we murongozi wabo. Bemeza ko Petero yabanye hafi na Kristo igihe Uwo mwigisha yari mw'isi, ariko ko Pauko yamye ahama abizera. Ivyiyumviro vyabo n'uburyo babona ibintu vyari bihagaze ku mwikeko. Ntiberekana ugutanga, uburwaneza, urukundo, vyerekana ko kristo aba mu m

Hari akaga ko uwo mutima wo kwirema ibice uzovukamwo akabi kabishe kw'ishengero rya Kristo, kandi Paulo yabwiwe n'Umwami kuvuga amajambo akomeye yo kubahanura n'ukurwanya ivyo bintu ku mugaragaro. Kuri abo bavuga ngo «Jeho ndi uwa Paulo; uwundi ati Jeho ndi uwa Apolo; uwundi ati Jeho ndi uwa Kefa; uwundi ati Jeho ndi uwa Kristo,» Paulo yababajije ati, «Mbega kristo aragabanijwemwo ibice? Paulo yarababambiwe? Canke mwabatijwe mw'izina rya Paulo?» Yabinginze avuga ati, «Nuko ntihakagire umuntu yirata abantu. Kuko vyose ari ivyanyu; ari Paulo, canke Apolo, canke Kefa, canke isi, canke urupfu, canke ibiriho, canke ibizoba, vyose ni ivyanyu, namwe muri aba Kristo, Kristo ni uw'Imana.» 1 Ab'i Korinto 1:12,13; 3:21-23.

Paulo na Apolo bari mu bumwe bwuzuye. Apolo yarababajwe n'izo ndyane zari mw'ishengero ry'i Korinto; ntiyashimishijwe n'uko bamukundwakaza, canke ngo abishigikire, ahubwo yihuse kuva muri iyo ntambara. Igihe Paulo inyuma y'aho yamusaba kwongera kugendera Korinto, yaranse kandi ntiyongeye gukorerayo,

gushika igihe ishengero ryari rimaze kugera ku rugero rwiza mu vya Mpwemu.

# Ikigabane ca 27: Efeso

*Iki Kigabane Gishitnikiye ku Vyakozwe n'Intnmwa 19:1-20.*

Igihe Apolo yariko aravuga ubutumwa i Korinto, Paulo yashikije isezerano ryiwe ryo gusubira muri Efeso. Yari yagendeye mu gihe gito i Yerusalemu kandi yari yamaze umwanya muto i Antiyokiya, aho yari yakoreye ubwa mbere. Nuko aca muri Aziya ya Hafi «aca mu gihugu c'i Galatiya n'i Furugiya» Ivyakozwe n'Intumwa 18:20, [147] agendera amashengero we ubwiwe yari yarashinze, kandi aremesha ukwizera kw'Abakristo. Mu gihe c'intumwa, igice c'uburengero bwa Asiya ya Hafi cari kizwi nk'Intara ya Asiya y'Abaroma. Efeso, umurwa mukuru, cari ikigwati gikomeye mu rudandaza. Ikivuko caho cari cuzuye amato, kandi amabarabara yaho yari yuzuye abantu bava mu bihugu vyose. Co kimwe na Korinto, wari umurima weze ku gikorwa c'ivugabutumwa. Abayuda, bari barasanzaye mu bihugu vyose biteye imbere, bari barindiriye ukuza kwa Mesiya. Igihe Yohana Umubatizi yariko yigisha, benshi, mu bari baje i Yerusalemu ku masabukuru y'umwaka, bari bumvise Yesu yamamazwa nka Wa wundi yasezeranywe, kandi bari batwaye izo nkuru mu turere twose tw'isi. Gutyo rero, Imana yari yateguriye inzira ibikorwa vy'intumwa.

Paulo ashitse muri Efeso, yahasanze bene Data cumi na babiri, co kimwe na Apolo bari abigishwa ba Yohana Umubatizi, kandi nkabo nyene, bari baramenye ivyo igikorwa ca Kristo. Ntibari bafise ubukerebutsi nk'ubwa Apolo, ariko bifuza nka we gukwiragiza hose ata buryarya ubumenyi baronse. Abo bene Data nta na kimwe bari bazi ku gikorwa ca Mpwemu Yera. Igihe Paulo yababaza ko baronse Mpwemu Yera, bishuye ngo «Ntitwari bwanavyumve yuko Mpwemu Yera yatanzwe. Paulo ababaza ati: «None mwabatijwe umubatizo ki?» bamwishura ngo,ni umubatizo wa Yohana.» Iyo ntumwa iherako ibasobanurira ukuri gukomeye kugize umushinge w'ivyizigiro vy'Abakristo. Yababwiye ivyo ubuzima bwa Kristo kuri iyi si, n'ivyo urupfu rwiwe rw'agashinyaguro rw'isoni. Yabab-

wiye ingene Umwami w'ubugingo yasenyuye inzitizi z'imva, maze akazuka atsinze urupfu. Yasubiyemwo itegeko Umukiza yahaye abigishwa biwe: «Jewe nahawe ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi. Nuko ni mugende, muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatiza mw'izina rya Data wa twese n'iryo Umwana n'irya Mpwemu yera.» Matayo 28:18, 19. Yarongeye kandi ababwira ivyo isezerano rya Kristo ryo kubarungikira Umwitsa, uwo muri we hazokorerwa ibimenyetso n'ibitangaza, yongera abereka ingene iryo sezerano ryasohoye mu cubahiro ku musi wa Pentekote.Abo bavukanyi bakiranye akanyamuneza n'igishika cinshi amajambo ya Paulo. Ku bwo kwizera batahuye neza ukuri gutangaje kw'Ikimazi c'impongano ca Kristo, kandi bamwakira nk'Umukiza wabo. Babatizwa mw'izina rya Yesu kandi ubwo Paulo «yabarambikako ibiganza,» baronka n'umubatizo wa Mpwemu Yera, wabashoboje kuvuga indimi z'ayandi mahanga no kuvugishwa. Gutyo rero bashobojwe gukora muri Efeso nk'abavugabutumwa b'injabukamazi muri Efeso no mu mu mihingo yaho, kandi no kuja kwamamaza ubutumwa bwiza muri Asiya ya Hafi.

[148] Ni mu nzira yo kwicisha bugufi no kwemera kwigishwa aba bantu baronse ubumenyi bwabashoboje kugenda nk'abakozi mu murima kwimburira Imana. Akarorero kabo ni icigwa gikomeye ku Bakristo. Hari abantu benshi badatera imbere cane mu vy'Imana kubera ko biyemera bakanka kuja mu kibanza c'abiga. Bishimira ubumenyi bw'amarenzako bw'ijambo ry'Imana. Ntibishimira guhindura ukwizera kwabo canke imikorere yabo, gutyo rero ntibagire akigoro ko kwakira umuco uruta uwo bafise. Iyaba Abakristo baronderana igishika ubwenge, boyobowe mu mirima y'ukuri itotahaye batari bwamenye. Uwuzokwihebera Imana azorongorwa n'ukuboko kw'Imana. Ashobora kuba nyarucari kandi agasa n'uwudafise ingabire, ariko agamburukiye itegeko ry'Imana n'umutima w'urukundo no kwizera, inkomezi ziwe zizotyororwa, zihingurwe, zikomezwe, kandi n'ubushobozi bwiwe bwiyongere. Ubwo abika ivyigwa vy'ubwenge bukomoka ku Mana, niko ahabwa igikorwa 1 cera; azoshobozwa guhindura ubuzima bwiwe icubahiro ku Mana n'umuhezagiro kw'isi. «Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco; guha abatungu ubwenge.» Zaburi 119:130.

Hari abantu benshi uyu musi batazi igikorwa ca Mpwemu Yera ku mutima, nk'uko abo muri Efeso bari bameze; ariko nta kuri kwok-

wigishwa neza nko mw'ijambo ry'Imana. Abavugishwa n'Imana ni intumwa barasesanguye uko kuri. Kristo wenyene aradusaba kwihweza ingene ibimera bikura, ngo bibe ingereranyo y'igikorwa ca Mpwemu wayo mu gushigikira ubuzima bwa Mpemu. Amazi y'umuzabibu, aduga ava mu mizi, agakwiragira mu mashami, atuma umuzabibu ukura kandi ukazana amashurwe n'ivyamwa. Niko n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera butanga ubugingo, buva ku Mukiza, bukwiragira mu mutima, bugahindura ivyiyumviro n'ivyipfuzo, kandi bugategeka n'ivyiyumviro kwumvira ubugombe bw'Imana, bugafasha uwubwakira kwama ivyamwa vy'ibikorwa vy'ubugororotsi. Uwutanga ubuzima bwa Mpwemu ntaboneka, kandi uburyo ubwo buzima butangwa bubungabungwa, birengeye ugutahura kw'ubwenge bw'umuntu. Ariko kandi ibikorwa vya Mpwemu vyama na ntaryo bihuje n'ijambo ry'Imana. Nk'uko biri mu bidukikije, niko bimeze no mu buzima bwa Mpwemu. Ubuzima bw'ibidukikije buzigamwa umwanya ku mwanya n'ubushobozi bw'Imana; ariko ntibushigikirwa n'igitangaza kigaragara, ariko buca mu gukoresha imihezagiro iri mu maboko yacu. Ubuzima bwa Mpwemu rero bubungabungwa mu gukoresha uburyo Imana yaduhaye. Namba umwigishwa wa Kristo ashaka gukura «akageza aho ashikira kuba umuntu akuze no ku rugero rw'ubwinshi bw'ukunengesera kwa kristo» (Abanyefeso 4:13), ategerezwa kurya ku mutsima w'ubugingo kandi akanywa ku mazi y'agakiza. Ategerezwa kuba maso, agasenga, agakora, muri vyose akitwararika inyigisho ziri mw'ijambo ry'Imana.

Hari n'ikindi cigwa mu vyashikiye abo Bayuda bahindukiriye [149]
imana. Igihe babatizwa na Yohana, ntibatahura neza igikorwa ca Yesu nk'Uwikorera ivyaha. Bari babitahuye ukutariko. Ariko bamaze kuronka umuco mwinshi, bakiranye akanyamuneza Kristo nk'Umucunguzi wabo, maze ku bwo iyo ntambwe bagize baca bahindura uburyo bwabo bwo gukora. Ubwo baronse ukwizera nyakuri, niko n'ubuzima bwabo bwahindutse. Ikimenyamenya c'iryo hinduka, n'icemezo ko bizeye Kristo, bongeye kubatizwa mw'izina rya Kristo.

Nk'uko wari umugenzo wiwe, Paulo yatanguriye igikorwa ciwe muri Efeso, avuga ubutumwa bwiza mw'isinagogi y'Abayuda. Yarabandanije kuhakorera amezi atatu, «aharira kandi abemeza ivyo ubwami bw'Imana.» Ubwa mbere bamwakiriye neza; ariko

nk'uko vyagenze mu tundi turere, ntibatevye kumurwanya. «Bamwe bikomantaje imitima, banka kwizera, batukira inzira ya Yesu imbere y'abantu.» Kubera babandanije kwanka kwakira ubutumwa bwiza, Paulo ntiyasubira kwigishiriza mw'isinagogi. Mpwemu w'Imana yakoranye kandi akorera muri Paulo igihe yigisha abo mu bwoko bwiwe. Ivyemezo bigaragara bihagije vyari vyaratanzwe ngo binyure abantu bose b'abanyakuri bipfuza kumenya ukuri. Ariko benshi biyemeje kuganzwa n'ivyiyumviro bigoramye, n'ukutizera, maze banka kwemera ukuri kugaragara. Ku bwo gutinya ko ukwizera kw'abo Bakristo kwogwa mu kaga kubera gukomeza kubana n'abo bantu barwanya ukuri, Paulo yitandukanije nabo, maze akoraniriza abigishwa hamwe, akomeza kwigishiriza abantu mw'ishure rya Turano, umwigisha rurangiranwa.

Paulo yabonye ko «urugi runini rukomeye» rwari rwuguruwe imbere yiwe, nubwo hari «abarwanizi benshi.» 1 Ab'i Korinto 16:9. Efeso nti carusha gusa ibisagara vyo muri Asiya kuba ciza, ariko kandi cabirusha n'ububi. Kwizera ibintazi n'ubuhumbu vyari vyariraye. Mu gitutu c'insengero zaho, hari hihishije ubwicanyi bw'ubwoko bwose, kandi ivyaha vy'agahomerabunwa vyari vyarahatse indaro.

Efeso cari icibare c'ikigirwamana Arutemi. Ubwiza bw'ingoro ya «Arutemi w'Abanyefeso» bwari bwabaye rurangiranwa muri Asiya yose no mw'isi. Ugukayangana kwayo ntikwatera ubwibone igisagara conyene, ahubwo igihugu cose. Ikigirwamana co muri iyo ngoro, bavuga ngo cakorotse kiva mw'ijuru. Kuri co hari handitswe amajambo y'imvugo ifobetse, abantu biyumvira ko afise ubushobozi buhambaye. Abanyefeso bari baranditse ibitabo vyo gusigura ubusobanuro bw'ivyo bimenyetso. Bamwe mu bihaye kwiga ivyo bitabo bizimvye cane, harimwo abanyamareba benshi, bari bafise ububasha ku vyiyumviro vy'abo bantu bizera ibintazi basenga ibishushanyo biri muri iyo ngoro. Intumwa Paulo, igihe yakorera muri Efeso, yahawe ibimenyetso bidasanzwe vyerekana ko Imana yari kumwe
[150] na we. Ubushobozi bw'Imana bwaherekeje utwigoro twiwe, kandi abantu benshi bakira indwara zabo z'umubiri. «Kandi Imana ikoresha amaboko ya Paulo ibitangaza vy'agaheta: vyatuma bashira abarwaye ibitambara n'imyambazo bivuye ku mubiri wiwe, bagakira indwara zabo, impwemu zihumanye zikabavamwo.» Ibimenyetso vy'ubushobozi bw'akataraboneka birengeye ibindi vyose vyakorewe

muri Efeso, kandi ntivyashobora kwiganwa n'abanyamareba canke abapfumu. Kubera ivyo bitangaza vyakorwa mw'izina rya Yesu Umunyanazareti, abantu baboneyeho akaryo ko kubona ko Imana yo mw'ijuru ikomeye kuruta abanyamareba basenga ikigirwamanakazi Arutemi. Gutyo rero Umwami ahesha icubahiro umusuku wayo, n'imbere y'abasenga ibigirwamana ubwabo, icubahiro kiruta ico abanyamareba baminuje.

Ariko, Umwe impwemu zose z'ikibi zitinya kandi yari yahaye abasuku biwe ububasha kuri zo, yari yiteguye kubakoza isoni ziruta izo, n'ukunesha abasuzugura kandi bagatuka izina ryiwe ryera. Ubupfumu bwari bwarabujijwe n'ivyagezwe vya Mose, kandi uwabirenga yaricwa, ariko rimwe na rimwe Abayuda bataye ukwizera barabikora mu mpisho. Igihe Paulo yagendera Efeso hari muri ico gisagara «inyererezi zimwe zo mu Bayuda zasenda impwemu zihumanye zigerera kuvugira izina ry'Umwami Yesu hejuru y'abatewe n'impwemu zihumanye.» Abahungu indwi b'Umuyuda yitwa Sekewa, umwe mu baherezi bakuru barageragezа batyo. Basanga umuntu arimwo impwemu zihumanye, bamubarira bati: «Turabategetse mw'izia rya Yesu, uwo Paulo avugira.» Ariko «ya mpwemu mbi ibishura, iti Yesu ndamuzi, na Paulo ndamuzi, ariko mweho muri ba nde? Maze uwo muntu arimwo impwemu ihumanye abagurukirako bompi, arabanesha, abagirira nabi, bahunga muri iyo nzu bambaye ubusa kandi bakomeretse.» Uku ni ko hatanzwe icemezo c'uko izina rya Yesu ari izina ryera, n'akaga karindiriye abaryambaza batizeye ko igikorwa c'Umukiza ari ico Imana. Bose baterwa n'ubwoba, izina ry'Umwami Yesu rishirwa hejuru.»

Ibintu vyari vyaranyegejwe noneho bija ahagaragara. Abizera bamwe, bari bakiriye Kristo, nti bari bahevye burundu kwizera ibintazi. Hamwe barakomeza ibikorwa vy'abanyamareba. Noneho baratahuye ubuzimire bwabo, «benshi mu bari barizeye baraza, batura ivyo bakoze, barabiserura.» Mbere no mu bakora ivyo ubupfumu, ico gikorwa ciza cabagezeko. Kandi «benshi no mu bakora ivyo ubupfumu bakoranya ibitabo vyabo vy'ubupfumu, babituririra mu maso ya bose: baharura igiciro cavyo, basanga gishitse ku ntete z'ifeza ibihumbi mirongo itanu. Uko niko ijambo ry'Umwami Yesu ryagwiriye cane, rigira ububasha.»Mu guturira ibitabo vyabo bivuga ivyo ubupfumu, Abanyefeso bahindukiriye Imana berekanye ko ibintu bahora banezererwa noneho babizinutswe. Ni mu vyo

ubupfumu cane cane bari barababaje Imana kandi bashira mu kaga
[151] imitima yabo: kandi ubupfumu nyene ni bwo bashavuriye. Gutyo, berekana ko bahindutse koko.

Ivyo bitabo vy'ubupfumu vyarimwo amategeko n'uburyo bwo kuvugana n'impwemu mbi. Yari amategeko yo gusenga Satani-amategeko yo kumusaba ubufasha no kumuronkako amakuru. Kugumya ivyo bitabo, abo bigishwa vyari kubabera ikigeragezo; kubigurisha naho, bari kuba bashize ikigeragezo mu nzira y'abandi-bantu. Bari bahakanye ubwami bw'umwiza, kandi gusenyura ubushobozi bwiwe ntibabigeze amajanja, n'ubwo vyabasaba ukwitanga uko ariko kwose. Ukuri kwaratsinze ivyiyumviro vy'abantu, n'umunoho w'amahera. Muri uku kwigaragaza kw'ubushobozi bwa Kristo, Abakristo baronse intsinzi ikomeye, ha handi nyene ukwizera ibintazi kwari kwarashinze imizi. Ivyo bintu vyabaye rurangiranwa kuruta uko Paulo yabitahuye. Inkuru zavuye muri Efeso zikwiragira kure, maze igikorwa ca Kristo kironka inkomezi zihambaye. Inyuma cane intumwa Paulo ubwiwe amaze guheza urugendo rwiwe, izo nkuru zagumye mu bwenge bw'abantu, maze ku bwo ivyo, abantu benshi bahindukirira ubutumwa bwiza.

Hari abibaza ko kwizera ibintazi vyarangiye imbere y'iterambere ryo mu kinjana ca mirongo ibiri. Ariko ijambo ry'Imana, n'ibikorerwa musi y'izuba, bidushingira intahe ko ubupfumu bukorwa muri uru runganwe nk'uko bwakorwa n'abanyamareba ba kera. Ubunyamareba bwa kera, mu vyo ukuri, busa neza neza n'ivyo twita uyu musi ukwizera imizimu kw'igihe ca none. Satani ahenda abantu ibihumbi n'ibihumbi mu kwiyerekana mw'ishusho y'abakunzi bacu bapfuye. Ivyanditswe Vyera bivuga ko «abapfuye ataco baba bakizi.» Umusiguzi 9:5. Ivyiyumviro, urukundo rwabo n'urwanko rwabo n'ishari ryabo vyose biba vyarashize: abapfuye ntibaba bagifise umugabane ku kintu na kimwe gikorerwa musi y'izuba. Ariko, nk'uko yakoresheje ubuhendanyi kera, Satani akoresha iyo nzira ngo yifatire abantu. Mu nzira yo kwizera imizimu, abarwaye benshi, abishwe n'agahinda, abantu batanyurwa n'ukuri bazi, baganira n'abadayimoni. Abantu bose bakora ivyo bari mu kaga. Ijambo ry'ukuri rivuga ingene Imana iraba abo bantu. Mu bihe vya kera yavuze amajambo akomeye acira urubanza umwami yari yarungitse umuntu ku muvugishwa w'umupagani: «Mbega icatumye muja kuri Bayali-zebubi iyo mana y'i Ekuroni kuraguza, ni uko ata Mana

yariho mu bw'Isirayeh? Uti none rero, uku ni ko Uhoraho agize, uti Ntuzovyuka ku kirwa uryamyeko, uti uzopfa nta kabuza.» 2 Abami 1:3,4.

Abanyamareba b'ibihe vya kera, basa n'abapfumu, n'ababurira abantu ivyo ubuzima bwabo. Ya majwi adasanzwe yavugira muri Endori no muri Efeso, n'uyu musi nyene aracazimiza abana b'abantu, akoresheje amajambo y'ubuhendanyi. Igihe igihuzu kiduhumye amaso cokinguruka, twobona abamarayika ba Satani bariko bakoresha ubwenge bwose bwo guhenda abantu no kubarimbura. Aho [152]
hose Satani akora ngo yibagize abantu Imana, aho niho akoresha inkomezi ziwe ziyovya ubwenge. Iyo abantu bemeye kuyoborwa nawe, bakwiye kwitega ko ayovya ubwenge bwabo akabwonona. Impanuro y'iyo ntumwa kw'ishengero rya Efeso ikwiye kwumvirizwa n'abantu b'Imana uyu musi: «Ntimugafatanye n'ibikorwa birumvye vy'umwiza, ariko cane-cane mubiserure.» Abanyefeso 5:11.

## Ikigabane ca 28: Imisi Y' Imiruho N'amageragezwa

*Iki Kigabane Gishimikiye ku Vyakozwe n'lntiimwa 19:21-41; 20:1.*

Mu myaka irenga itatu Paulo yihatiye gukorera muri Efeso. Ishengero rikomeye ryari ryarubatswe ho, maze ubutumwa bwiza bukwiragira mu ntara ya Asiya buhereye muri ico gisagara, haba mu Bayuda canke mu banyamahanga. Iyo ntumwa yari imaze igihe yiyumvira urundi rugendo rwo kuja kuvuga ubutumwa. «Yiyumvira mu mutima wiwe guca i Makedoniya no muri Akaya aja i Yerusalemu, ati Ninamara gushikayo, nkwiye kuja kuraba n'i Roma na ho.» Ku bw'ivyo «atuma abagenda bamukorera babiri, Timoteyo na Erasito;» ariko yiyumvira ko igikorwa muri Efeso kikimukeneye, ahitamwo kuguma aho gushika Pentekote irangiye. Ariko havyutse ibintu vyatumye yihutira kugenda.

Rimwe mu mwaka, ibirori bidasanzwe vyakorerwa muri Efeso ku bwo kuninahaza ikigirwamanakazi, Arutemi. Ivyo birori vyakwega abantu benshi bava mu mihingo yose y'intara. Muri ico kiringo, imisi mikuru yakorwa mu buryo buhambaye kandi buteye igomwe.

Ico gihe c'ibirori cari ikigeragezo ku bantu bashasha bakiriye Kristo. Umugwi w'abizera wakoranira mw'ishure rya Tirano ntiwaryoheje ivyo birori vy'indirimbo, kandi barabatwenze, barabihamza, mbere barabatuka ata camira. Ibikorwa vya Paulo vyari vyabangamiye abasenga imana za gipagani, ku buryo igitigiri c'abitavye ibirori vy'isabukuru y'igihugu cagabanutse cane, mbere n'igishika c'abasenga imana za gipagani kiragabanuka. Inyigisho ziwe zarenze imbibe z'abahindutse Abakristo. Benshi mu batari bakiriye inyigisho za Kristo ku mugaragaro baramurikiwe mu buryo badohotse ku mana zabo za gipagani.

Hari n'iyindi mvo yatumye batakibinegwa. Urudandazwa rukomeye kandi ruzana inyungu rwari rwarateye imbere muri Efeso bivanye n'ugucura no kugurisha utunyabugoro n'udushushanyo, dukozwe nk'ingoro hamwe n'igishushanyo ca Arutemi. Abari bar-

ihebeye ico gikorwa basanze inyungu zabo zigenda zigabanuka, maze bose bavuga rumwe bemeza ko ibikorwa vya Paulo ari vyo vyatumye abantu batakibahurumbira.

Demetiriyo, umucuzi w'ifeza yacura utunyabugoro, akoranirlza hamwe abakora ibikorwa bene ivyo, ati: «Yemwe bagabo, murazi yuko ubutunzi bwacu buva muri iki gikorwa. Murabona kandi murumva yuko atari muri Efeso honyene, ariko nko muri Asiya hose, umwe Paulo yoheje abantu benshi akabahindura, ati imana zakozwe n'intoke si zo mana: Si uko -igikorwa cacu kiri mw'irinde kigiye gukengerwa gusa, ariko kandt n'ingeso y'igitabo c'imanakazi ihambaye Arutemi yotiturwa, mbere yonakurwako icubahiro cayo gikomeye, ariyo abo muri Asiya bose n'isi yose basenga.» [153]

Ayo majambo yatumye abantu bashavura. «Barasugurirwa, barasemerera, bati Arutemi y'Abanyefeso irahambaye.» Iyo nkuru ntiyatevye gukwiragira hose. «Maze igisagara cose kiravurungana.» Baherako barondera Paulo, ariko ntibamubona. Bene Data, bari bagabishijwe, bari baciye bamutorokesha. Abamarayika b'Imana bari barungitswe kurinda iyo ntumwa; igihe ciwe co gupfa azira ukwizera nticaribwashike.

Babonye babuze uwo batako ishavu «bafata Gayo na Arisitariko, Abanyamakedoniya, bagendana na Paulo,» bashwabadukira rimwe babaterera mu kibanza c'ibirori. Ikibanza Paulo yari yihishijemwo nti cari kure, kandi ntiyatevye kumenya ko bene Data bakundwa bari mu kaga. Yibagira umutekano wiwe, yifuza kubanza kuja mu kibanza c'ibirori ngo avugane n'abo bagumutsi. Ariko «abigishwa ntibamwemerera.» Gayo na Arisitariko si bo barondèrwa; nta kibi gihambaye bari kubakorera. Ariko iyo birabukwa mu maso h'iyo ntumwa, ivyo birandamuke vyari kumugurukirako kandi nta buryo bwari kuboneka bwo kumurokora. Paulo n'ubu yari acifuza gushingira intahe ukuri imbere y'iryo sinzi ry'abantu, aiko yongera agabishwa n'ubundi butumwa buvuye mu kibuga c'ibirori. «Bamwe mu bakuru bo muri Asiya, kuko bari abagenzi, bamutumako bamwinginga ngo yoye kwiroha mu kibuga c'ibirori.»

Urwamo mu kibuga c'ibirori rwakomeje kwiyongera. «Bamwe . ... ukwabo, abandi ukwabo: kuko iryo shengero ryavurunganye, abenshi batari bazi icatumye bakorana.» Kubera Paulo na bamwe mu bo bagendana bari Abaheburayo, vyatumye Abayuda bashaka kwerekana ku mugaragaro ko badafatanije na bo, n'igikorwa cabo.

Nuko basokorora umwe mu bantu, bamwigiza imbere. Uwo bari batoye kuvuga yari Alekisandero, umwe mu bacuzi, uwo Paulo mu nyuma yahavuye avuga ko «yamugiriye inabi nyinshi.» 2 Timotyo 4:14. Alekisandero yari umuntu w'ijunja, kandi yakoresheje inkomezi ziwe zose ngo atume abanyagihugu bahagurukira Paulo gusa n'abagendanyi biwe. Ariko ishengero ribonye ko Alekisandero ari Umuyuda, bamwigizayo maze «bose basemerera icarimwe, bamara nk'amasaha abiri, bavuga bati Arutemi y'Abanyefeso irahambaye.»Bamaze kuruha, baherako baracereza, haba agacerere
[154] k'umwanya muto. Nuko umukuru w'igisagara ahoza ishengero kandi ku bwo icubahiro ciwe baramwumvira. Abafatira ku majambo yabo, abereka ko ata mpamvu bafise yo gutera induru. Abasaba gukoresha ubwenge, arababarira ati, «Bagabo b'Abanyefeso, mbega hari umuntu atazi yuko igisagara c'Abanyefeso ari co kizigama ingoro y'igitabo c'imanakazi ihambaye Arutemi, ari co gishushanyo cakorotse kiva mw'ijuru? None ko ata woshobora guhakana ivyo, mukwiye guhora, no kutagira ico mukora mutitonze. Kuko muzanye aba bagabo, bativye ivyo mu ngoro z'imana kandi batarogose ku manakazi yacu. Nuko Demetiriyo n'abacuzi bari kumwe na we, namba bafise uwo barega, imisi y'imanza iriho, kandi hariho n'ivyegera vya Kayisari, nibaregane. Ariko ni mwaba mufise ibindi murondera, bizomarirwa mu rukinja rusanzweho. Mbere turi mw'irinde, kumbure ibibaye uyu musi vyotuma turegwa ubugarariji, kuko ata nyanduruko; kandi ntituzoshobora gusobanura icakoranije iri shengero rivurunganye. Avuze ivyo acura ikoraniro.»

Mw'ijambo ryiwe, Demetiriyo yari yavuze ngo, «igikorwa cacu kiri mu kaga.» Ayo majambo yahishuye impamvu nyakuri y'iyo mivurungano muri Efeso, n'icatumye agahamo kakurikiye intumwa mu gikorwa cabo. Demetiriyo n'abacuzi bagenziwe babonye ko inyigisho n'ugukwiragira kw'ubutumwa bwiza bizobangamira igikorwa cabo co gucura ibishushanyo. Inyungu z'abaherezi b'abapagani n'abahinga zari zibangamiwe, ni co gituma bahagurukiye Paulo ngo bamurwanye.

Ingingo y'umukuru w'igisagara n'abandi bahambaye bo mu gisagara yari yashize Paulo imbere y'ishengero nk'uwudafise ico yagirizwa. Iyi yabaye iyindi ntsinzi y'Abakristo ku makosa no ku kwizera ibintazi. Imana yari yahagurukije umucamanza akomeye kuvugira intumwa yayo no gufata ishengero ry'abo bantu ngo ntiri-

gire ico ryonona. Umutima wa Paulo wuzuye amashimwe ku Mana kuko yazigamye ubuzima bwiwe kandi kubera ko Ubukristo butakojejwe isoni n'abo bagumutsi muri Efeso. «Umugumuko umaze guhera, Paulo atumako abigishwa, arabahanura, arabasezera, avayo aja i Makedoniya.» Muri urwo rugendo, yaherekejwe na bene Data b'intungane bo muri Efeso, Tukiko na Tirofimo.

Ibikorwa vya Paulo muri Efeso vyari birangiye. Igikorwa ciwe cari cabaye ico gucumukura ata guhemuka, c'amageragezwa menshi, n'agahinda kenshi. Yari yarigishije abantu mw'ikoraniro no mu nzu ku yindi, akorora amosozi menshi abigisha, kandi abahanura. Igihe cose yari yararwanijwe n'Abayuda, batigeze batakaza akaryo ko kumushuhurirako abanyagihugu. Kandi igihe yarwana atyo n'abamurwanya, abandanya igikorwa atiziganya, kandi yitwararika inyungu z'ishengero ryari rikiri rito mu kwizera, Paulo yari afise n'umutwaro uremereye w'imitima y'amashengero yose. Inkuru z'abahakanye ukwizera mu yashinze zamuvuna umutima. [155]
Yatinya ko utwigoro twiwe kuri bo twohava tuba impfagusa. Amajoro menshi yayararako asenga, kandi yiyumvira, ubwo yumva inzira zikoreshwa zo kurwanya igikorwa ciwe. Iyo akaryo kabonetse kandi nabo nyene bakagaragaza ingorane zabo, yarandikira amashengero, abamira, abahanura, abinginga, kandi abatera umwete. Muri ayo makete, Paulo ntarandira ku ngorane ziwe, ariko rimwe na rimwe aragacishamwo akavuga ibikorwa vyiwe n'imibabaro yaboneye mu gikorwa ca Kristo. Inkoni, gutabwa mu mabohero, imbeho, inzara n'inyota, akaga mu nzira no mu kiyaga, mu bisagara no mu bugaragwa, ivyo yaterwa n'abo mubo iwabo, abapagani, na bene Data b'ibinyoma bibi vyose yaravyihanganiye ku bwo ubutumwa bwiza.-» Yarambikwa ibara,» «agatukwa,» «yahindutse akabarore,» «akazazanirwa,» «agahamwa,» «agasagirizwa mu mpande zose,» «akaba mw'irinde igihe cose,» «imisi yose agatabarwa mu rupfu ku bwa Kristo.»

Hagati y'imikuba y'urudaca y'abarwanizi, induru y'abansi, n'uguhebwa n'abagenzi, iyo ntumwa y'inshigwarimenetse yahatswe gucika intege. Ariko yarangamije inyuma i Kaluvari, maze n'inkomezi nsha arushiriza kumenyekanisha uwababambwe. Nta kundi yari kugira kiretse guca mu nzira y'amaraso Kristo yaciyemwo. Ntiyarondeye kuruhuka urugamba atarashikana ibirwanisho vyiwe ku birenge vy'Umukiza wiwe.

# Ikigabane ca 29: Ubutumwa Bwo Kugabisha No Kwinginga

*Iki kigabane Gishimikiye kw 'Ikete rya Mbere ku Bakorinto.*

Urwandiko rwa mbere kw'ishengero ry'i Korinto rwanditswe na Paulo mu gice ca nyuma ari muri Efeso. Nta bandi bantu yigeze kwitwararika cane canke acumukurira nk'abizera b'i Korinto. Yari yamaze umwaka n'igice akorera muri bo, abereka ko Umukiza yabambwe kandi akazuka, ari We nyene nzira y'agakiza, kandi abingingira kwihambirira ku bushobozi bwiwe bushobora guhindura umuntu. Imbere yo kwakira mw'ishengero abizeye Kristo, yitwararika kubaha inyigisho zidasanzwe zerekeye amahirwe n'amabanga y'Umukristo, kandi yagerageza kubafasha kudatirimuka ku masezeranoy'umubatizo. Paulo yari azi neza intambara umuntu wese ategerezwa kurwana ku bwo ibikoresho vy'umurwanizi birondera na ntaryo guhenda no kuboha, kandi yari yakoze atiziganya ngo akomeze kandi aremeshe abari basha mu kwizera. Yari yabasavye abinginga ngo bihebere Imana; kuko yari azi yuko iyo umuntu atitanze, icaha ntigihebwa, ivyifuzo bibandanya birwana ngo bitegeke, maze ibigeragezo bikazazanira ubwenge.

[156] Kwitanga gutegerezwa kuba burundu. Umuntu wese w'intege nke, akekeranya, arwana yihebeye Umwami atiziganya, anywanishwa n'ibikoresho bimushoboza gutsinda. Ijuru riba hafi yiwe. Kandi ashigikiwe n'abamarayika buzuye impuhwe mu gihe cose c'akaga n'ubukene. Abizera b'ishengero ry'i Korinto bari bakikijwe n'abasenga ibigirwamana n'ubuhumbu butagira uko buvugwa. Igihe Paulo yari kumwe na bo, ivyo bigeragezo ntivyari bibafiseko ubushobozi bunini. Ukwizera gukomeye kwa Paulo, amasengesho yiwe y'urudaca n'amajambo yiwe yuzuye inyigisho, kandi n'ikiruta vyose, ubweranda bwiwe bwari bwababafashije kwiyanka ku bwa Kristo kuruta kwinezereza mu caha.

Ariko Paulo amaze kugenda, ibihe bikomeye vyarigaragaje, urwamfu umwansi yari yarabivye rwaserutse mu ngano, kandi ntir-

watevye kuzana ivyamwa vyarwo bibi. Iki cari igihe c'ikigeragezo gihambaye kw'ishengero ry'i Korinto. Paulo ntiyari akiri kumwe na bo, ngo abatere umwete kandi abafashe mu twigoro twabo two kubaho nk'uko Imana ibishaka, maze bukebuke bahinduka abanebwe na basindabibazwa, kandi bemerera kamere n'ivyifuzo vyabo kubaganza. Uwari yahoze abingingira kugendera mu nzira z'ubugororotsi n'ubutungane ntiyari akiri muri bo, kandi benshi mu bari baritandukanije n'ingeso zabo mbi igihe bizera, basubiye ku vyaha vy'agahomerabunwa vy'ubupagani. Paulo yari yandikiye iryo shengero mu ncamake, abasaba «kutivanga n'abasambanyi;» ariko benshi muri bo bagoretse ubusobanuro bw'amajambo y'iyo ntumwa, barayakengera, maze biregura batanga imvo zatumye badakurikiza impanuro ziwe.

Ishengero ryandikiye Paulo rimusaba impanuro ku bintu bimwe bimwe, ariko ntibacishije mu kanwa ivyaha bibabaje vyakorewe muri bo. Ariko iyo ntumwa yabwiwe na Mpwemu Yera ko ubuzima bw'ukuri bw'ishengero bwari bwirengagijwe kandi ko urwo rwandiko rwari rugendereye kumukuramwo amajambo abanditsi bari guhava bakoresha ngo bashikire imigambi yabo. Muri ico gihe havuye muri Efeso abantu bo mu nzu ya Kilowe, Umukristo ashingirwa intahe nziza i Korinto. Paulo yababajije uko ishengero ryifashe, bamubwira ko ishengero rirangwa n'ukwica ibice. Indyane zari zigaragaje igihe Apolo yabagendera zari ziyongereye cane. Abigisha b'ibinyoma bariko bosha abizera ngo basuzugure inyigisho za Paulo. Inyigisho n'amategeko y'ubutumwa bwiza vyari vyaragoretswe. Ubwibone, gusenga ibigirwamana, ubuhumbu, vyariko biriyongera hagati y'abari bahoze ari intwari mu Bukristo. Amaze kumenya uko ibintu vyifashe, Paulo yabonye ko ico yari yaratinye ari co cashitse. Ariko ntiyiyumviriye ku bwo ivyo ko igikorwa ciwe cabaye impfagusa: yarondeye inama ku Mana «afise agahinda n'amarira menshi.» Yari kunezerwa aciye agendera Korinto, igihe iyo yari kuba ari yo nzira nziza. Ariko yatahuye ko mu kiringo barimwo ibikorwa vyiwe ntaco vyari kwungura abizera, [157]
niko gutuma Tito gutegura inzira, ngo nawe azobagendere hanyuma. Niko gushira i ruhande ivyiyumviro vyiwe afise kuri iyo nyifato yabo bantu bari berekanye ingeso ziteye isoni, yerekeza ivyiyumviro ku Mana, maze Paulo yandikira ishengero ry'i Korinto ikete rihambaye kandi ryuzuye inyigisho kuruta izindi zose yanditse.

Yahereyeko yishura atarya umunwa ibibazo vyinshi vyabajijwe n'ishengero, maze atanga impanuro rusangi, zobafasha gushika ku rugero rwo hejuru mu vy'impwemu igihe bozishira mu ngiro. Bari bageze ahanyerera, ntiyari rero kureka gukora ku mitima yabo mu gihe gikomeye nk'ico. Yabagabishije neza neza ko bari mu kaga, kandi abakarira ku bwo ivyaha vyabo. Yongeye kubereka Kristo kandi abateramwo umwete musha nk'uwo bari bafise igihe bizeye. Urukundo rutangaje iyo ntumwa yakunda abizera b'i Korinto rwagaragariye mu ndamutso y'urukundo yahaye iryo shengero. Yabibukije ingene bateye umugongo ibigirwamana bagakorera Imana nyakuri. Yabibukije ingabire za Mpwemu Yera bari barahawe, maze abereka ko ari umugisha kuri bo gukurira mu Bukristo, kugeza aho bazoshikira ubwiza n'ubugororotsi vya kristo. Yanditse ati, «Muri vyose mutungiye muri We, mu vyo muvuga vyose, no mu bwenge bwose; kuko ugushingira intahe Kristo kwakomeje muri mwebwe: Bituma mutagira ingabire n'imwe muhaza, mwiteze guhishurwa kw'Umwami wacu Yesu Kristo. Ni we azobakomeza gushitsa kw'iherezo, kugira ngo ntimuze mugawe kuri wa musi w'Umwami wacu Yesu Kristo.»Paulo yavuze atarya umunwa ivyo amacakubiri yiyadukije mw'ishengero ry'i Korinto, kandi asaba abizera guhagarika indyane. Yanditse ati, «Ndabinginga, bene Data, mw'izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo, mwese mube imvugarimwe, kandi n'ibice ntibiremwe muri mwebwe; ariko mutunganywe rwose hamwe, muhuje umutima n'inama.» Iyo ntumwa yumvise ko ifise umwidegemvyo wo kuvuga ingene yaronse inkuru z'ayo macakubiri mw'ishengero, n'uwazimuhaye. «Kuko nabariwe ivyanyu, bene Data, n'abo kwa Kilowe, yuko hari imitongano muri mwebwe.»

Paulo yari intumwa irongorwa na Mpwemu. Ukuri yigisha abandi yakuronse «mw'ihishurirwa;» ariko Umwami ntiyamuhishurira igihe cose uko abantu biwe bifashe. Muri ico gihe, abari barajwe ishinga n'iterambere ry'ishengero ry'i Korinto, kandi bari babonye ibibi bibazigirije, bari babimenyesheje iyo ntumwa, maze afatiye ku vyo yari yarahishuriwe n'Imana kera, yashoboye gutahura ivyo bintu. Batitayeho ko Umwami yari yamuhaye uguhishurirwa kujanye n'ivy'ico gihe, abari banyotewe umuco bakiriye ubutumwa bwiwe nk'ubuvuye kwa kristo ubwiwe. Umwami yari yamweretse ingorane n'akaga vyari bigiye kuvyuka mw'ishengero, kandi, ubwo

ibibi vyiyongera, niko Paulo yatahura ubusobanuro bwavyo. Yari yashizweho kubwo kurwanira ishengero. Yategerezwa kwitwararika imitima nk'uwuzoyibazwa n'Imana, none ntivyumvikana kubona yaritwararika ivyo bamubariye ku budumbidumbi n'amacakubiri [158] ari muri bo? Nta nkeka; kandi amajambo yari yanditse, koko yari yahumetswe n'Imana, co kimwe n'ayandi makete yiwe yose.

Iyo ntumwa ntiyavuze ku vyo abigisha b'ibinyoma barondera guhonya ivyamwa vy'igikorwa ciwe. Kubera umwiza n'amacakubiri vyari mw'ishengero, yagize ubwenge mu kutabashavuza abibutsa ivyo bintu, atinya ko yohava atuma bamwe baheba ukuri burundu. Kubwo igikorwa yakoreye muri bo, avuga ko yabaye«umwubakisha mukuru w'ubwenge,» yashizeho itanguriro abandi bubatseko. Ariko ntiyishize hejuru ku bwo ivyo; kuko yavuze ati, «Turi abakozi hamwe n'Imana.» Ntiyirase ubwenge bwiwe, ariko yatahuye ko ubushobozi bw'Imana bwonyene bwamushoboje kwigisha ukuri mu buryo bushimisha Imana. Yifatanije na Kristo, Umwigisha w'abigisha, Paulo yashobojwe kwigisha ivyigwa vy'ubwenge bw'Imana, yashoboye kwishura ibibazo vy'abantu b'ivyiciro vyose, kandi vyari bijanye n'ibihe vyose, uturere twose, bihwanye n'ingorane zose.

Kimwe mu bibi vyari vyatse indaro mu bizera b'i Korinto, harimwo gusubira mu migenzo y'ubuyobe y'ubupagani. Umwizera umwe yari yarasubiye inyuma gushika n'aho yiha umwidegemvyo wo guhonyanga itegeko ryo hasi mu vyo ingeso nziza, mbere n'abapagani bubahiriza. Iyo ntumwa yasavye ko ishengero «rikura uwo munyakibi muri bo.» Yabahanuye ati «Ntimuzi ko umwambiro muke wambira irobe ryose? Nuko ni mukureho umwambiro wa kera, kugira ngo mube irobe risha, nk'uko mutarimwo umwambiro.» Akandi kabi kabishe kari kadutse mw'ishengero kari ako kuregana mu bucamanza. Integuro zihagije zari zarakozwe ngo ingorane zari hagati mu bizera zitorerwe umuti. Yesu ubwiwe yari yaratanze inyigisho zitomoye ku buryo bwo gutunganya amatati. «Mugenzawe niyakugirira nabi, ugende umuhishuke mwiherereye; niyakwumvira, uzoba wigaruriye mugenzawe. Ariko natakwumvira, ujane umwe canke babiri, kugira ngo ijambo ryose rize riringanizwe, bivuye mu kanwa k'ivyabona bibiri canke bitatu. N'atabumvira ubwire ishengero; niyanka kwumvira ishengero na ryo, kuri wewe azoba nk'umunyamahanga n'umutozakori. Ndababwire ukuri: ivyo mu-

zohambira mw'isi vyose bizoba bihambiriwe mw'ijuru; kandi ivyo muzohamburura mw'isi vyose, bizoba bihamburuwe mw'ijuru.» Matayo 18:15-18.

Ku bizera b'i Korinto bari baribagiye iyi mpanuro, Paulo yabandikiye mu majambo yo kubahanura no kubakankamira. Yabajije ati, «Mbega hari uwo muri mwebwe yogira ico apfa na mugenziwe, akubahuka kuburanira ku bagabitanya, ntaburanire ku bera? Nti muzi yuko abera ari bo bazocira ab'isi urubanza? Kandi ko ari mwebwe muzocira ab'isi urubanza, ntimubereye guca imanza
[159] nto-nto? Ntimuzi ko tuzocira abamarayika urubanza? None ntiturushiriza kuba abo guca imanza z'ivy' ubu bugingo?»

Satani na ntaryo agerageza kwinjiza mu bantu b'Imana ukutizigirana, ugukumirana, n'ukugiriranira nabi. Kenshi dushobora kwiyumvira ko tunyazwe uburenganzira bwacu, kandi mu kuri ata cotuma twiyumvira dutyo. Abikunda kuruta uko bakunda Kristo n'igikorwa ciwe bazoshira imbere inyungu zabo, kandi bazokora ivyo bashoboye vyose ngo bazigumye. Mbere benshi no mu basa n'Abakristo b'umutima, hari bamwe babuzwa n'ubwibone, no kwibona ko ari beza, kugenda mu mwiherero gusanga abo bibaza ko bari mu makosa, ngo bavugane nabo nk'uko Kristo abisaba, no gusengeranira. Ku vyo biyumvira ko bababajwe na bene Data, bamwe mbere bashengezanya mu bucamanza aho gukurikiza itegeko ry'Umukiza. Abakristo ntibemerewe kwitabaza sentare z'igihugu ngo zitunganye ingorane zishobora kwaduka mu bizera. Izo ngorane bategerezwa ubwabo kuzitorera umuti canke ishengero, hakurikijwe amajambo ya Kristo. Naho yoba yarenganijwe, umwigishwa wa Yesu yitonda kandi yiyorosha azemera «kimyagwa» kuruta kwereka ab' isi ivyaha vya bene Data bo mw'ishengero. Imanza hagati y'abavukanyi zitukisha ukuri. Abakristo bashengezanya mu manza batuma abansi b'ishengero bitwengera, bagatuma inkomezi z'umwiza zironka intsinzi. Bakomeretsa Kristo ukundi gusha kandi bakamukoza isoni. Mu kwirengagiza ububasha bw'ishengero, bakengera Imana, yo yahaye ishengero ububasha bwayo.

Muri iri kete ku Bakorinto, Paulo yagerageje kubereka ubushobozi Kristo afise bwo kubarinda gukora ikibi. Yari azi ko nibisunga amategeko yabahaye, bazokomerera mu nkomezi z'Iyishoboravyose. Kugira ngo abafashe kuva mu buja bw'icaha ngo bashikire ubweranda mu kwubaha Umwami, Paulo yabaragije

Uwo bari barahebeye ubuzima bwabo igihe bahindukirira Imana. Yavuze ati, Muri abakristo, ntimucigaba, ubwanyu.... Mwaguzwe igiciro: Nuko rero mushimishe Imana mu mibiri yanyu no mu bwenge bwanyu, vyegukira Imana.»Iyo ntumwa yerekanye ingaruka yo guheba ubuzima bugororotse kandi bwera bagasubira mu bikorwa bipfuye vy'ubupagani. Yabandikiye ati, «Ntimuzimire: abashakanyi, canke abasenga ibigirwamana, canke abasambanyi,... canke ibisuma, canke abifuza, canke imborerwa, canke abatukana, canke abanyazi, ntibazoragwa ubwami bw'Imana.» Yabinginze kuganza ivyifuzo n'umunoho wabo. Yababajije ati, «Ntimuzi ko umubiri wanyu ari urusengero rwa Mpwemu w'Imana ari muri mwebwe, mwahawe n'Imana?

Ubwo Paulo yari afise ingabire zikomeye z'ubwenge, ubuzima bwiwe bwagaragaje ubushobozi bukomeye bw'ubushishozi, vyamushoboza kwihuta gutahura, n'umutima w'impuhwe, wamufasha kwegerana n'abantu, bimutuma kubosha gukora ivyiza, n'ukubafasha guharanira ubuzima bubereye. Umutima wiwe wari [160]
wuzuye urukundb rutagira akagero ku bwo abizera b i Korinto. Yifuza kubabonamwo ukwubaha Imana kwobakomeza mu kwirinda ikigeragezo. Yari azi yuko kuri buri ntambuko mu nzira y'Ubukristo bazorwana n'isinagogi ya Satani kandi ko bazorwana buri musi. Bazokwirinda uburyarya bw'umwansi, abategeka kugaruka ku ngeso za kera, no guhengamira ku vyo umubiri, kandi bakama bagavye basenga. Paulo yari azi ko urugero rwo hejuru mu Bukristo rushikwako gusa mu gusenga cane no kwama turi maso, maze ivyo akagerageza kubibateramwo. Ariko kandi yari azi ko muri Kristo yabambwe baronse ubushobozi buhagije bwo guhindura umuntu kandi agahinduka umwana w'Imana, ngo ashobore kwirinda ibigeragezo vyomujana mu kibi. Hamwe no kwizera Imana nk'inkinzo, n ijambo ryayo nk'ikirwanisho, bazoronka ububasha bwobashoboje kwirinda imyampi y'umwansi.

Abizera b'i Korinto bari bakeneye kumenyera ivy'Imana. Ntibari bazi neza ico bisobanura kwitegereza ubwiza bwiwe, n'uguhindurwa bava kuri kamere baja mu yindi. Bari babonye gusa imishwarara ya mbere y'umutwenzi w'ubwo bwiza. Ico Paulo yabifuriza, kwari uko buzura ukunengesera kw'Imana, bakabandanya kumumenya, n'ukumwigako, kurya imikuba y'ibahari yitegura mu gi-

tondo, bagashika ku kwizera ubutumwa bwiza bwuzuye, nk'imikuba y'ibahari y'igicamusi.

## Ikigabane oa 30: Guhamagarirwa Gushika Ku Rugero Rwo Hejuru

*Iki Kigabane Cishimikiye kw 'lkele rya Mbere ku Bakorinto*

Kubera yizera ko yokwumvisha abizera b'i Korinto akamaro ko gutegeka imibiri yabo, kwigerera n'ugukorera Kristo batiziganya, Paulo mw'ikete yabandikiye yatanze isano ry'agakura riri hagati y'intambara y'Umukristo n'ihiganwa ryo kwiruka n'amaguru ryahora rikorerwa hafi y'i Korinto mu bihe bimwe bimwe ntabanduka vy'umwaka. Mu nkino zose z'Abaroma n'Abagiriki, kwiruka n'amaguru ni rwo rwari urwa kera cane kandi rwashimwa kuruta izindi. Zarorerwa n'abami, abaganwa, n'abategetsi b'igihugu. Abasore rurangiranwa kandi batunze ntibazitangwamwo, kandi ntibiziganya mu gukora ibisabwa vyose kugira ngo batahane intsinzi.

Amahiganwa yagengwa n'amategeko ruhasha kandi ntayegayezwa. Abipfuza kwiyandikisha muri ayo mahiganwa bategerezwa kubanza guca mu myimenyerezo ikomeye ngo bitegure. Imfungurwa zonona umubiri canke zigabanya inkomezi z ubwenge n'umubiri zari zibujijwe. Kugira ngo umuntu yizere intsinzi muri ayo mahiganwa yakenera inguvu n'ubukerebutsi, imitsi yategerezwa kuba ikomeye kandi inonotse, kandi n'udutsi twumva tukagenzurwa neza.Ico umuntu akora cose gitegerezwa kutabamwo ukwihenda, intambwe yose yihuta kandi idatirigana; inguvu z'umubiri zitegerezwa gushika ku rugero rwo hejuru. [161]

Ubwo abahinga baseruka imbere y'isinzi ry'abarorerezi, amazina yabo yaratangazwa, n'amategeko y'ihiganwa atangwa mu majambo yumvikana. Nuko rero bose bagatangurira icarimwe, amaso adakubita akagohe y'abarorerezi akabatera umwete wo kwihatira gutahana intsinzi. Abatanga amanota bicara i ruhande y'ishikiro, kugira ngo babone abiruka uhereye kw'itanguriro gushika kw'iherezo, kandi ngo bahe ingororano uwatahanye intsinzi ata kwihenda. Iyo bishitse umunmtu akaba uwa mbere ataciye mu mategeko, yataha zirayoye. Mu mahiganwa harabamwo amasanganya akomeye. Bamwe

mbere ntibigera bakira izo mvune z'umubiri. Vyari ibisanzwe ko abantu batembagara bariko bariruka, bakavirirana mu kanwa canke mu mazuru, kandi rimwe na rimwe uwuhiganwa yashobora kuvamwo yapfuye kandi yari yegereje intsinzi. Ariko ingorane y'uko umuntu yocika ikimuga canke agapfa ntibababibona nk'igihambaye bagereranije n'ingororano y'icubahiro yahabwa uwatahukanye intsinzi. Ubwo umwirutsi yegereza ishikiro, isinzi ry'abarorerezi ryakoma amashi akuzura ikirere, kandi agasamiranira no ku dusozi n'imitumba ihakikije. Mu maso y'abarorerezi, umucamanza w'inkino yamuha ibimenyetso vy'intsinzi-Urugori rugizwe n'amababi y'urwatsi rutoto n'ishami ry'ikigazi yatwara mu kuboko kw'iburyo. Intsinzi yiwe yahimbazwa mu gihugu cose; abavyeyi biwe baronka uruhara rwabo rw'icubahiro; mbere n'igisagara yabamwo carubahwa cane kubera cavyaye umimonotsi akomeye.

Paulo, agereranije ayo mahiganwa yo kwiruka nk'igitutu c'intambara Rukristo, yashize akatuzo ku mwiteguro ukenewe kugira ngo umuntu atahukane intsinzi mu kwiruka,imyiteguro y'ibanze, mu gutoranya imfungurwa, kwigerera gukenewe. Yavuze, ati «Umuntu wese azorushanywa yitegura muri vyose,» Abirutsi birinda ikintu cose cogabanya inkomezi, kandi bakamenyereza imibiri yabo imyimenyerezo iruhisha kandi y'urutavanako, kugira ngo ikomere kandi yihanganire gukoresha inkomezi zabo zose. Mbega Umukristo ntiyorushiriza, kubera arondera inyungu zidashira, gutegeka umubiri n'ivyifuzo vyose bigakora ubugombe bw'Imana! Nta na rimwe yosamazwa n'ibihunbaro n'ukwiryohcrcrerwa, canke ngo arondere kwiyorohereza. Ingeso n'ivyifuzo vyose bitegerezwa gutozwa indero ruhasha. Ubwenge, bumurikiwe n'inyigisho z'ijambo ry'Imana, kandi buyobowe na Mpwemu wayo, bugategeka umubiri wose.

[162] Kandi ibi bimaze gukorwa, Umukristo ategerezwa kugira utwigoro twose dushoboka kugira ngo atware intsinzi. Mu nkino z'i Korinto, intambwe nkeya za nyuma z'abahiganwa zakorerwamwo akigoro ko gupfa n'ugukira kugira ngo ntibagabanye ubunyarutsi. Niko bimeze no ku Mukristo, ubwo yegereza iherezo, azokomeza urugendo mbere akoreshe umwete mwinshi uruta uwo yakoresheje mu ntango y'urugendo rwiwe. Paulo yerekana ubudasa buri hagati y'urugori rw'ivyatsi bikabirana ruhabwa uwatsinze mu kwiruka,

n'urugori rw'ubwiza budapfa ruzohabwa uwiruka mw'ihiganwa Rukristo. Avuga, ati «Bagenza batyo ngo bahabwe urugori rushira, ariko twebwe tugenza dutyo kugira ngo duhabwe urutazoshira.» Kugira baronke ingororano ishira, abirutsi b'Abagiriki ntibiziganya mu gikorwa canke mu kwibabaza. Turwanira ingororano irengeye agaciro, urugori rw'ubugingo budashira. Mbega ntitworushiriza kugira utwigoro no kwemera tukitanga kandi tukiyanka!

Mw'ikete ku Baheburayo harerekana intumbero nyamukuru yogenga ihiganwa ry'Umukristo ku bwo ubugingo budashira: «Nuko natwe twiyambure ibituremera vyose, n'icaha gikunda kutwizingirako vuba, dusiganirwe ivyo twasizwe imbere twihanganye, dutumbereye Yesu wenyene, niwe nyanduruko zo kwizera, kandi niwe yagusozereye.» Abaheburayo 12:1, 2. Ishari, uburyarya, ivyiyumviro bibi, kuvuga abandi nabi, kwifuza- iyi ni imitwaro Umukristo ategerezwa kwiyambura namba ashaka gutahukana intsinzi y'ubugingo budashira. Akamenyero kose, canke ico dukora kitujana mu caha bitukisha Kristo bitegerezwa kwigizwa yo, naho vyodusaba akigoro kadashoboka. Imihezagiro y'Imana ntihabwa umuntu uwo ari we wese ahonyanga amategeko y'ubugororotsi. Icaha kimwe gusa dukuyakuya kirahagije ngo gititure kamere kandi kiyovye abandi.Umukiza yavuze, ati «Ukuboko kwawe nikwagutsitaza, uguce igikonjo; vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo ucitse igikonjo, hako uja muri Gihenomu mu muriro utazima ufise amaboko yompi: N'ikirenge cawe nicagutsitaza, ugice; vyokubera vyiza kwinjira muri Gihenomu ucitse ikirenge, hako utererwa muri gihenomu ufise ibirenge vyompi.» Mariko 9:43-45. Namba kugira ukize umubiri urupfu ikirenge canke ikiganza vyopfuma bicibwa, canke ijisho rikanokorwa, mbega Umukristo ntiyokora uko ashoboye kwose ngo yirinde icaha, co kizanira umuntu urupfu? Abo bahiganwa mu nkino za kera, bamaze kwiyima no kwiha amategeko akomeye, nta n'ubwo bari bafise icemezo ko bazotsinda. Paulo yabajije, ati: «Ntimuzi yuko mu birori abasiganwa biruka bose, ariko uherwa akaba umwe? Naho abasiganwa bokwiruka nk'abita kw'ibuye, impera yahabwa umwe gusa. Ikiganza kimwe gusa ni co cashobora gufata rwa rugori rwifuzwa. Vyarashika umuntu akagira akigoro k'umurengera ngo aronke ingororano, ariko agira aramvure ukuboko ngo afate, uwundi mu kanya isase akaza imbere yiwe [163]
agacakira ubwo butunzi bifuza.

Uku siko bimeze mu ntambara Rukristo. Nta n'umwe yemeye gukurikiza ibisabwa azobura ingororano ahejeje kwiruka. Nta n'umwe yinanase, akagumye akagumako, azobura intsinzi. Mu gusiganwa, impayamaguru sizo zisiga abandi kandi mu ntambara abanyenkomezi sibo batsinda. Umweranda w'intege nke kuruta abandi, co kimwe n'uwukomeye kuruta abandi, bashobora kwambara urugori rw'ubwiza budashira. Abo bose bagenda nk'uko kristo agomba, ku bwo ubushobozi bw'ubuntu bw'Imana, bashobora gutsinda. Gukurikiza ido n'ido amategeko y'ijambo ry'Imaria kenshi na kenshi bifatwa minenerwe- ngo ni ibintu bito ku buryo umuntu atovyitaho. Ariko ku bijanye n'ibi, nta kintu na kimwe ari gito. Ikintu cose dukora gipimwa ku munzane, ku buryo gishobora gutuma dutsinda canke tukaneshwa. Kandi ingororano ihabwa abanesha izoba ingana n'utv/igoro, n'ukwitanga twakoranye.

Iyo ntumwa yigereranije n'umuntu yiruka, ashiramwo inkomezi zose ngo atahukane intsinzi. Avuga, ati «Nuko nanje ndiruka, ariko si nk'uwutazi iyo aja: nkubitana ibipfunsi, ariko si nk'uwuhusha; kandi ndwanya umubiri wanje, nkawuhindura umuja: kugira ngo kumbure maze kwigisha abandi, nanje ubwanje sinze mboneke ko ntemewe.» Kugira ngo ntaze yirukire ubusa mu kwiruka Rukristo, Paulo yitegereje imyimenyerezo ruhasha. Aya majambo «ndwanya umubiri wanje,» asobanura ngo kuwufata mu gutegeka ivyifuzo, ivyo ugambiriye gukora, n'ivyo uhahamiye. Paulo yatinya ko, amaze kwigisha abandi, we ubwiwe yokumiririrwa. Yatahuye ko n'atakurikiza amategeko yizera kandi akigisha, ibikorwa yakoreye abandi vyomubera impfagusa. Ibiganiro vyiwe, ijunja ryiwe, kwanka kwumvira ivyifuzo vy'umubiri wiwe, bitegerezwa kwerekana ko idini ryiwe atari umwuga azeyemwo uburaro n'uburamuko gusa, ahubwo ko buri musi yagendana n'Imana. Intumbero imwe gusa niyo yamiza imbere yiwe, kandi akihatira kuyishikako- «Ukugororoka kuva ku Mana, kumwe kuzanwa no kwizera Kristo.» Ab'i Filipi 3:9.

Paulo yari azi ko intambara yo kurwana n'ikibi itazohera igihe cose azoba akiri muzima. Yatahura na ntaryo akamaro ko kwizitirira ngo ivyifuzo vy'isi ntibitsinde umwete wiwe mu vya Mpwemu. Yakomeza kwivuna n'inkomezi ziwe zose ivyifuzo vy'umubiri. Yagumiza mu mutima wiwe intumbero azoshikako, kandi iyi ntumbero yihatira kuyishikako mu kwumvira ubugombe bw'ivyagezwe

vy'Imana. Amajambo yiwe, ibikorwa vyiwe, ivyifuzo vyiwe, vyose yabitegekesha Mpwemu w'Imana. Iyi ntumbero nyamukuru yo gutsinda ihiganwa ry'ubugingo budashira niyo Paulo yifuza kubona yigaragaza mu buzima bw'abizera b'i Korinto. Yari azi ko kugira ngo ashikire urugero rwa Kristo ku bwabo, bari bafise imbere yabo urugamba rw'ubuzima bwose batazohumeka kurwana. Yabingmze kwihatira buri musi kuronderana ubutungane ukwubaha [164] Imana n'imitima irondera gukora ibigororotse ku rwego rwo hejuru. Yabinginze gushira i ruhande umutwaro wose no kubandanya bagana ku bunengesere bwo muri Kristo.

Paulo yeretse Abanyakorinto ivyabaye mu b'Isirayeli ba kera, imihezagiro bahawe ku bwo kwumvira Imana, n ibihano vyakurikiye ibigabitanyo vyabo. Yarabibukije uburyo butangaje Abaheburayo bavanywe mu Misiri bakingiwe n'igicu ku mutaga, mw'ijoro naho n'inkingi y'umuriro. Uku ni ko bayobowe mu Kiyaga Gitukura, Abanyamisiri bagerageje kujabuka bobo bagasoma nturi. Ku bwo ibi bikorwa Imana yerekanye ko Isirayeli ari ishengero ryayo. «VYose bagasangira vya vyokurya vy'impwemu, kandi bose basangira vya vyokunywa vy'impwemu: kuko banywa ku gitandara c'impwemu cabakurikira: kandi ico gitandara, cari Kristo.» Abaheburayo, mu ngendo zabo zose, bari bafise Kristo nk'umurongozi. Rwa rutare rwakubitwa rwari igitutu rwagereranya Kristo, yategerezwa kuzokomeretswa ku bwo ibigabitanyo vy'abantu, ngo umugezi w'agakiza usendere kuri bose. Hatarabwe ubuntu Imana yagiriye Abaheburayo, kwifuza ibihimbaro vy'ivyaha bashize inyuma mu Misiri, kandi kubera ivyaha n'ubugarariji bwabo, ibihano vy'Imana vyabaguyeko. Iyo ntumwa yasavye abizera b'i Korinto kwigira ku vyabaye ku b'Isirayeli. Yavuze ati: «Ivyo vyose vyatubereye akarorero kugira ngo ntitwifuze ibibi, nk'uko bamwe bo muri ba bandi bavyifuje.» Yaberetse ingene gukunda kwiyorohereza n ibinezero vyateguriye inzira ivyaha vyahamagaye uguhora kw'Imana. Mu gihe abana b'Isirayeli bicara ngo barye kandi banywe, maze bagahaguruka ngo batambe, niho bataye ukwubaha Imana, kumwe bari bafise igihe bumviriza ariko arabaha ivyagezwe; kandi bakoze ikinyana c'mka gishushanya Imana, baragisenga. Kandi igihe bari bamaze kwinezereza, benshi mu Baheburayo biroshe mu bushirasoni. Uburake bw'Imana bwaraziririnze, kandi ku bwo itegeko

ryayo «abantu ibihumbi mirongo ibiri na bitatu» barimbuwe n'ikiza ku musi umwe.

Iyo ntumwa yasavye abanyakorinto iti, «Nuko rero uwiyumvira ko ahagaze ni yiyubare ntagwe.» Iyo bishira hejuru kandi bakiyemera, bakanjanjwa ku kuba maso no gusenga, bari kugwa mu vyaha biteye agahinda bakihamagarira uburake bw'Imana. Ariko kandi Paulo ntiyipfuza ko bacika intege. Yabijeje ati: «Imana ni iyo kwizigirwa, ntizobakundira ko mugeragezwa n'ibiruta ivyo mushobora; ariko, hamwe n'ibibagerageza izobacira icanzo, kugira ngo mubone ingene mushobora kwihangana.»Paulo yasavye abavandunwe biwe kwibaza ico amajambo n'ibikorwa vyabo bikora ku bandi bantu, n'ukutagira ico bakora naho coba kigaragara ko ari gito, cosa nk'uko gishigikiye gusenga ibigirwamana, canke cobabaza abanyantege nke
[165] mu kwizera. «Nuko iyo murya, canke munywa, canke mukora ikindi kintu cose, mube mukorera vyose gushimisha Imana. Ntimubere Abayuda igitsitaza, canke Abagiriki, canke ishengero ry'Imana.»

Amajambo y'iyo ntumwa yo kugabisha ishengero ry'i Korinto araba ibihe vyose, na cane cane igihe turimwo. Mu kuvuga gusenga ibigirwamana, ntiyashaka kuvuga gusenga ibishushanyo, ahubwo kandi yavuga n'ukwikwegerako, gukunda kwinezerereza, gukurikira ivyifuzo vy'umubiri. Kuvuga gusa ngo wizera Kristo, ukiratira kumenya ukuri, ntibihindura umuntu kuba Umukristo. Idini rirondera gusa kunezereza ijisho, ugutwi, n'ibiryohera umubiri, canke ishigikira ukwikunda, si idini rya kristo.

Mu kugereranya ishengero n'umubiri, iyo ntumwa yashaka kwerekana neza imigenderanire itegerezwa kuba hagati y'abantu bose bagize ishengero rya Kristo. Yanditse ati, «Kuko muri Mpwemu umwe ari ho twese twabatirijwe ngo tabe umubiri umwe, naho boba Abayuda canke Abagiriki, naho boba abagurano canke abidegemvya; kandi twese twanyweshejwe Mpwemu umwe. Umubiri si urugingo rumwe, ariko ni nyinshi. Ikirenge covuga, kiti ko ntari ikiganza sindi uwo ku mubiri; ivyo ntivyotuma kitaba ico ku rnubiri. Kandi ugutwi kwovuga, kuti ko ntari ijisho, sindi uwo ku mubiri. Iyo umubiri wose uba ijisho, kwumva kwobaye hehe? Iyo wose uba kwumva, ukumoterwa kwobaye hehe? Ariko noneho Imana yashizeho ingingo z'umubiri, urugingo rwose aho agomvye. Kandi iyo zose ziba urugingo rumwe, umubiri wobaye hehe? Ariko noneho, ingingo ni nyinhsi, umubiri ukaba umwe.Kandi ijisho

ntirishobora kubarira ikiganza, ngo Ntaco umariye; canke umutwe kubarira ibirenge, ngo ntaco umariye. . . . Imana yafatanije umubiri hamwe, urugingo rukeneye icubahiro iruha icubahiro kirushiriza, kugira ngo umubiri ntiwireme ibice, ariko ingingo zibabarane kumwe. Kandi iyo urugingo rumwe rubabaye, ingingo zose zirababazanywa na rwo; canke urugingo rumwe ruhawe icubahiro, ingingo zose zihimbaranwa na rwo. Namwe muri umubiri wa kristo, kandi umuntu wese wo muri mwebwe ni urugingo rwawo.» -

Hanyuma rero, mu majambo yabereye abagabo n'abagore isoko yo kuvomamwo ivyiyumviro no kubatera intege, Paulo yavuze akamaro k'urwo rukundo abigishwa ba Kristo bategerezwa guhurumbira: «Naho novuga indimi z'abantu n'izo abamarayika, ariko ntagira urukundo, noba ncitse umuringa uvuga, canke icuma kivuzwa kigasama. Kandi naho nogira ingabire yo kuvugishwa n'Imana, nkamenya amabanga yose, n'ubwenge bwose, kandi naho nogira ukwizera kwose, ngashobora gukuraho imisozi, ntagira urukundp, noba ndi ubusa. Kandi naho notanga ivyanje vyose, ngo ndabigaburire aboro, kandi naho notanga umubiri wanje ngo nturirwe, ariko ntagira urukundo, nta co vyomarira.»

Naho yovuga gute ko ari Umukristo, umuntu umutima wiwe [166]
utuzuyemwo urukundo akunda Imana n'abantu, si umwigishwa wa Kristo w'ukuri. Naho yogira ukwizera gukomeye kandi akagira n'ubushobozi bwo gukora ibitangaza, atagira urukundo, ukwizera kwiwe kwoba impfagusa. Ategerezwa kugaragaza umutima wo gutanga; ariko, abikoze ku zindi mvo atari urukundo nyakuri, akagaburira ivyiwe aboro, ico gikorwa nticoshimwa n'Imana. Mbere ashobora n'ukugira umwete udasanzwe agapfira ukwizera kwiwe, ariko atabikoze ku bwo urukundo, Imana yomuraba nk'uwuriko agira ikinamico canke indyadya irondera ico yoshikako. «Urukundo rurihangana, kandi rugira neza; urukimdo ntirugira ishari; urukundo ntirwihayagiza.» Umunezero utagira akarohe ududubiza uva mu gushirWa hasi. Abantu bahambaye kandi b'inyankamugayo bubatswe ku mushinge wo kwihangana, mu rukundo, n'ukwumvira ubugombe bw'Imana. Urukundo «ntirukora ibiteye isoni, ntirurondera ivyarwo, ntirwiciraho, ndrwiyumvira ikibi ku bandi.» Urukundo rwa kristo rushira hejuru ibikorwa vy'abandi. Ntirugaragaza amakosa yabo bidakenewe. Ntirunezerwa no kwumva ibibi bivugwa ku bandi, ariko rurondera gushira

imbere ivyiza vy'abandi. Urukundo «ntirunezererwa ukugabitanya kw'abandi, ariko runezeranwa n ukuri; rurenzako muri vyose, rwizera vyose, rwizigira vyose, rwihanganira vyose.» Urwo rukundo «ntirushira.» Ntirutakaza agaciro karwo, ni ingabire yo mw'ijuru. Ni ubutunzi bw'agaciro, uwurufise azorwinjirana mu marembo y'igisagara c'Imana. «None rero hagumyeho ukwizera, n'ivyizigiro, n'urukundo, ivyo uko ari bitatu: ariko ikibiruta ni urukundo.» Mu gusubira inyuma kw'ingeso nziza mu bizera b'i Korinto, hari abari barataye ibintu ngenderwako vy'ukwizera kwabo. Bamwe bari bageze kure, gushika bihakane n'inyigisho y'izuka. Paulo yarwanije ubwo buzimire mu gutanga igishingantahe ntahinyuzwa c'izuka rya Kristo. Yavuze ati Kristo amaze gupfa, «yazutse ku musi ugira gatatu, nk'uko Ivyanditswe bivuga,» hanyuma yiyereka Kefa, maze yiyereka bamwe cumi na babiri, yongera yiyereka bamwe bene Data basaga amajana atatu, muri abo abenshi baracariho n'ubu, ariko bamwe barasmziriye. Maze yiyereka Yakobo, hanyuma yiyereka intumwa zose. Hanyuma ya bose naje aranyiyereka.» Iyo ntumwa, n'ubushobozi bwo kwemeza, yerekanye ukuri guhambaye kw'izuka. Yabatomoreye, ati «asangwa abapfuye batazuka na Kristo ntaranazuka: kandi asangwa Kristo atazutse, ivyo twigisha ni ivyo ubusa, n'ukwizera kwanyu ni uko ubusa. Natwe twoba twabonetse ko turi abashingira Imana intahe y'ikinyoma; kuko twayishingiye intahe yuko yazuye kristo, uwo itazuye, namba abapfuye batazuka. Namba abapfuye batazuka na Kristo ntarakazuka: kandi asangwa Kristo atazutse, ukwizera kwanyu ni uko ubusa; muracari mu vyaha vyanyu. Kandi asangwa bimeze bityo, n'abasmziriye muri Kristo
[167] barayogeye. Asangwa muri ubu bugingo bwonyene ari ho twizigira kristo, turusha abandi bantu bose kuba abagowe. Ariko noneho Kristo yarazutse mu bapfuye, niwe yabereye abapfuye umushuzo.»

Iyo ntumwa yerekeje ubwenge bwa bene Data b'i Korinto ku gitondo c'izuka, igihe aberanda bose basinziriye bazozuka, maze bakabana n'Umwami wabo ibihe bidashira. Iyo ntumwa yavuze, iti «Ehe ndababarire akabanga: ntituzosinzira twese, ariko twese tuzohindurwa, mu kanya gato, mu kanya nk'ako gukubita urugohe, aho inzamba y'iherezo izovugira: kuko inzamba izovuga, abapfuye bakazurwa

batagishobora kubora, natwe tuzohindurwa. Kuko uyu mubiri ubora ukwiye kwambara ukutabora, kandi uyu mubiri upfa ukwiye

kwambara ukudapfa. Ariko uyu ubora ni wamara kwambara ukutabora, n'uwudapfa ukambara ukudapfa, niho hazoshika rya jambo ryanditswe, ngo urupfu rumizwe n'intsinzi. Wa rupfu we, intsinzi yawe iri hehe? Wa rupfu we, uruboyi rwawe ruri hehe? . . Ariko Imana ishimwe, iduha gutsinda ku bwo Umwami wacu Yesu Kristo. Intsinzi y'ubwiza irindiriye abazoba abizigirwa. Iyo ntumwa, ibonye ibindi birindiriye abizera b'i Korinto, yarondeye gushira imbere yabo ibikura umuntu ku vyo kwikunda n'ivyo umuntu akorakora, maze agashira hejuru ibishira hejuru ubuzima bw'ivyizigiro vyo kudapfa. Yabahanuye kudatirimuka ku muhamagaro uhambaye uri muri Kristo. Yabinginze ati «mukomere ntimunyiganyige, murushirize imisi yose gukora ibikorwa vy'Umwami wacu, kuko muzi yuko uburuhe bwanyu atari ubwo ubusa mu Mwami.»

Gutyo, iyo ntumwa yagerageje yivuye inyuma kandi mu majambo y'inkoramutima gukosora ivyiyumviro n'ibikorwa vy'ubuzimire kandi biteye ubwoba vyari vyariraye mw'ishengero ry'i Korinto. Yavuze atarya umunwa, ariko agaragaza urukundo abakunda. Mu majambo yiwe yo kugabisha no kwihanikiza yavamwo umuco uva ku ntebe y'ubwami bw'Imana-ukayanganira kuri bo, ngo uhishure ivyaha bihishijwe vyariko birahumanya ubuzima bwabo. Mbega bazoyakira bate?

Iryo kete rimaze kugabanganywa, Paulo yatinya ko kumbure ivyo yanditse bizohava bikomeretsa cane abo yifuza ko ryogirira ikimazi. Yakoresheje ubwenge bwinshi ku gutinya ko yohava avyura izindi ngorane, mbere rimwe na rimwe yashatse n'ugusubiramwo amajambo yiwe. Abumva umutwaro w'amashengero canke ibigo bakunda cane, nibo bashobora gutahura neza amadidane yiwe n'ukwicuza kwiwe. Abasuku b'Imana biremetse umutwaro w'igikorwa cayo muri iki gihe barazi ingene bigenda mu gikorwa, intambara n'imyitwarariko vyaguye kuri iyo ntumwa y'agakura. Yaremerejwe n'amacakubiri yo mw'ishengero, abantu b'intashima n'ubuguranyi bwari muri bamwe bamwe yari yitezeko impuhwe n'ubufasha, abona akaga k'amashengero akuyakuya icaha, bimusaba gukurikirana hafi ivyabo, agerageza kwihanikiriza icaha, kadi atinya ko kumbure yoba yarakabije mu majambo yiwe yanditse [168]
akankamira icaha. Yarindiriye ahinda agashitsi inkuru yovuga ingene bakiriye ubutumwa bwiwe.

## Ikigabane ca 31: Ubutumwa Bwaritwararitswe

*Iki Kigabane Gishimikye kw 'Ikete rya Kabiri ku Bakorinto*

Avuye muri Efeso, Paulo yateguye urundi rugendo rwo kuja kuvuga ubutumwa, yizigiye ko azosubira kuraba aho yakoreye mu Burayi. Atebera gato i Tirowa, «avuga ubutumwa bwiza bwa Kristo, asanga abantu bamwe bari biteze kwumviriza ubutumwa bwiwe. Mu nyuma yavuze ku bwo ibikorwa vyiwe muri ico kibanza ngo «Umwami yanyugururiye urugi.» Naho utwigoro twiwe twari twatahukanye intsinzi i Tirowa, ntiyashobora kuhateba cane. «Umwitwarariko w'amashengero yose,» na cane cane ishengero ry'i Korinto, waramuremera cane mu mutima. Yari yipfuje guhurira na Tito i Tirowa ngo amucire agace ingene amajambo yiwe yo guhanura n'ukwihanikiza Abakorinto yakiriwe, ariko ntivyashobotse. Yanditse kuri ivyo, ati «nta gahengwe nagize mu mutima wanje kubera ntabonanye na mwene Data Tito.» Nuko yanduruka i Tirowa maze ajabuka Makedoniya, aho yahwaniye na Timoteyo i Fihpi. Muri ico gihe c'umwitwarariko ku bwo ishengero i Korinto, Paulo yiyumvira ko kumbure agiye kugira agahengwe; ariko vyarashika akumva akababaro kamwuzuye umutima, ati kumbure impanuro n'ukugabisha vyiwe vyohava bitahurwa nabi. Mu nyuma yanditse, ati «umubiri wacu ntiwaribwatenzukirwe na gatoya, kuko twababajwe uburyo bwose; inyuma intambara, imbere hari ubwoba. Ariko Imana ihumuriza abicisha bugufi yaduhumurishije ukuza kwa Tito.»

Iyo ntumwa y'intungane yazanye inkuru zinezereje, yuko ihinduka ritangaje ryari ryabaye mu bizera b'i Korinto. Benshi bakiriye inyigisho zo mw'ikete rya Paulo, kandi bihanye ivyaha vyabo. Ubuzima bwabo ntibwari bugitukisha Ubukristo, ahubwo bwazanye ubushobozi bwafashije abantu kwubaha Imana. N'akanyamuneza kenshi, iyo ntumwa yarungikiye abizera b'i Korinto ikete rya kabiri ryerekeye akamwemwe k'umutima ku bwo igikorwa ciza cakorewe muri bo: Naho nabateje umubabaro rya kete ryanje, sinicuza, naho nari naricujije.» Igihe yatekerwa n'ubwoba ko amajambo yiwe

yokengerwa, vyarashika akicuza yuko yanditse amajambo akaze cane. Arakomeza, ati «Noneho ndanezerewe; sinezerejwe n'uko mwagize umubabaro, ariko ni uko uwo mubabaro wabateye kwihana: kuko mwagize umubabaro mu buryo bw'Imana, kugira ngo ntihagire ico mubura ku bwacu. Umubabaro wo mu buryo bw'Imana utera kwihana kuticuzwa, kuzana agakiza: ariko umubabaro wo [169]
mu buryo bw'isi utera urupfu.» Uko kwihana guterwa n'ubuntu bw'Imana ku mutima kuzoyobora umuntu ku kwatura n'uguheba icaha. Ivyo ni vyo vyamwa iyo ntumwa ivuga ko yabonye mu buzima bw'abizera b'i Korinto. «Ntimubona uwo mubabaro wo mu buryo bw'Imana, ukuntu wabateye umwete mwinshi utyo? Kandi ko wabateye no kwiregura, no guhigimanga, no gutinya, n'inkumbu, n'ishaka, no guhana?

Paulo yari amaze igihe yikoreye umutwaro w'imitima ku bwo amashengero- Umutwaro uremereye cane ku buryo atashobora kuwihanganira. Abigisha b'ibinyoma, bari bagerageje gusenyura igikorwa Paulo yari yarakoze mu bizera, kandi babategeka gukurikiza inyigisho zabo mu kibanza c'ubutumwa bwiza bw'ukuri. Ibizazane no gucika intege vyari bizigirije Paulo bihishuwe muri aya majambo, «Twaremerewe cane, biruta uko dushobora, bigatuma twihebura ko tutagikiza amagara yacu.»Ariko noneho kimwe mu vyabatera akababaro cari kivuyeho. Yumvise inkuru nziza ko Abakorinto bakiriye ikete ryiwe, Paulo yaranezerewe avuga, ati: «Imana y'Umwami wacu Yesu Kristo, ari yo Se, iragahezagirwa, Data wa twese w'imbabazi, kandi Imana yirura imibabaro yose, itwirura mu marushwa yacu yose, kugira ngo natwe tubone uko twirura imibabaro abari mu marushwa yose, tuyibiruza uko natwe twiruwe n'Imana. Nk'uko ivyo Kristo yababajwe vyarushirije kutuzako, niko n'ukwirurwa kwacu kwarushirije kugwizwa na kristo. Iyo tubabazwa, kuba ari ukugira ngo bibazanire ukwirurwa, bo n'agakiza: kandi iyo twirurwa kuba ari ukugira ngo bibazanire ukwirurwa nyene, guserukira mu kwihanganira imibabaro imwe n'iyo natwe tubabazwa. Kandi ivyo tubazigako birashikamye, kuko tuzi yuko, ko musangiye natwe iyo mibabaro, dusangiye n'ukuyirurwa.»

Mu kwerekana umunezero wiwe ku bwo ukwihana ukundi gusha n'ugukurira mu buntu, Paulo aha Imana amashimwe yose ku bwo iri hinduka ry'umudma n'umubiri. Yavuze anezererwe ati «Imana ishimwe, yama iduha gutsinda muri kristo, idutera kwerekana ubu-

mote bwo kumumenyekanisha ahantu hose. Kuko turi ubumote bwiza bwa Kristo ku Mana, hagati y'abariko barakira n'abariko barahona.» Wari umugenzo ku muntu yatsinze mu ntambara kuzana kuri uwo musi abantu b'abanyororo. Ico gihe abantu batwara imibavu baratorwa, maze uko abasirikare bajandajanda batahanye intsinzi, akamoto k'imibavu kasobanura ko izo nyagano zegereje urupfu, kakaba akanovera k'urupfu, kerekana ko begereje igihe cabo co kwicwa; ariko ku banyororo bagiriwe impuhwe n'ababacakiye mu rugamba, ubuzima bwabo bukaba bwaziganijwe, kari akanovera k'ubuzima, kuko vyerekana ko umwidegemvyo wabo wegereje.

[170] Paulo noneho yari yuzuye ukwizera n'ivyizigiro. Yumva ko Satani adategerezwa gutsinda igikorwa c'Imana i Korinto, maze aninahaza Imana agaragaza ishimwe ry'umutima wiwe. We n'abakozi bagenziwe, bazokwigina intsinzi yabo ku bansi ba kristo n'ukuri, mu kuja imbere n'umwete musha wo kwagura igikorwa co kumenyekanisha Umukiza. Ubumote bw'ubutumwa bwiza bwari bugiye gukwira isi yose nk'imibavu. Kuri abo bazokwakira Kristo, ubutumwa buzobabera akanovera k'ubuzima gatanga ubuzima; ariko ku bazobandanya banka kwizera, buzobabera akanovera k'urupfu kazana urupfu. Abonye ingene igikorwa gitera imbere, Paulo yaratangaye, ati «Ibi tubikesha nde?» Ni nde yoshobora kwamamaza Kristo ku buryo abansi biwe bazobura inzira bacamwo yo gukengera intumwa canke ubutumwa itwaye? Paulo yifuza kwumvisha abizera igikorwa bajejwe ku bwo ubutumwa bwiza. Kuvuga ijambo ry'Imana nk'abizigirwa, bafise ubuzima butyoroye, butomoye, ico ni co nyene cotuma utwigoro tw'abavugabutumwa twemerwa n'Imana kandi tugirira akamaro imitima. Abavugabutumwa ba none, baremerewe n'uwo mwitwarariko w'ubwaguke bw'igikorwa, bashobora gutangara hamwe n'iyi ntumwa, bati «Ni nde dukesha ibi bintu?»

Hari abantu bari bareze Paulo ko yishimagije mw'ikete ryiwe rya mbere. Iyo ntumwa rero yagize ico ibivugako mu kubaza abanywanyi b'ishengero niba bamucira urubanza ku catumye abandikira. Yabajije ati «Mbega dutanguye kwongera kwishimagiza? Canke dukeneye amakete yo kudushimagiza, mwandikiwe canke mwanditse, nk'uko bamwe bandi bagomba?»Abizera bagiye mu kibanza gishasha kenshi bitwaza amakete yo kubemeza avuye mw'ishengero bahoramwo; ariko abakozi b'abarongozi, abashinze ayo mashengero, ntabwo bakenera ayo makete. Abizera b'i ko-

rinto, bahoze basenga ibigirwamana bakakira ubutumwa bwiza, bari ubwabo ayo makete Paulo yari akeneye. Kwakira ukuri, n'uguhinduka mu buzima bwabo, vyashingira intahe ubutungane bw'ibikorwa vyiwe, n'ububasha bwiwe bwo guhanura, kwamira ikibi, n'ukuremesha nk'umukozi wa kristo.

Paulo yabona bene Data b'i Korinto nk'ikete ryiwe rizomushingira intahe. Yavuze, ati «Ni mwebwe kete ryacu, ryanditswe ku mitima yacu, iyo abantu bose bamenya bagasoma. Kuko muboneka ko muri ikete Kristo yatwandikishije, nk'uko igikorwa cacu kiri; kitandikishijwe na wino, ariko candikishijwe Mpwemu w'Imana nzima; kitanditswe ku bisate vy'amabuye, ariko canditswe ku bisate, ni vyo mitima y'inyama.» Uguhindukirira Imana kw'abanyavyaha n'ukwezwa kwabo biciye mu kuri, ni co cemezo gihambaye umukozi w'Imana afise, cemeza ko Imana yamuhamagaye mu gikorwa. Icemezo c'uko ari intumwa canditse ku mitima y'abo bahindukiriye Imana, maze kikagaragazwa n'ubuzima bwabo bwahindutse. Kristo ahinguwe muri bo, We vyizigiro vy'ubwiza. Umukozi w'Imana [171]
akomezwa cane n'ibi bidodo vy'igikorwa ciwe.

Uyu musi abakozi ba Kristo bategerezwa gushingirwa intahe nk'iyo ishengero ry'i Korinto ryashingiye ibikorwa vya Paulo. Ariko naho muri iki gihe hari abigisha ijambo ry'Imana benshi, abavugabutumwa babishoboye, bubaha Imana, abantu buzuye rwa rukundo rwari mu mutima wa kristo ni bake. Ubwibone, ukwiyemera, gukunda isi, kurondera amakosa mu bandi, ishavu, ishari, ni ivyamwa vyikorewe na benshi mu bavuga ko bari mw'idini rya kristo. Ubuzima bwabo, butandukanye cane n'ubuzima bw'Umukiza, kenshi butanga igishingantahe giteye agahinda ca kamere y'igikorwa c'ivugabutumwa catumye bahindukirira Imana.Nta teka umuntu ashobora kuronka rirengeye iryo kwemerwa n'Imana nk'umukozi w'ubutumwa bwiza. Ariko abo Umwami ahezagiza ubushobozi n'ukuroranirwa mu gikorwa ciwe ntibishira hejuru. Batahura ko ata co bokora batagifashijwe na We, bakamenya ko ubwabo ata bushobozi bafise. Paulo avuga ati «si uko dushobora ubwacu kwiyumvira ikintu cose nk'aho ari twebwe candurutseko, ariko dushobozwa n'Imana; niyo yadushoboje kuba abakozi b'isezerano risha.»

Umukozi w'ubutumwa bwiza w'ukuri akora igikorwa c'Umwigisha wiwe. Atahura akamaro k'igikorwa ciwe, agatahura ko imigen-

deranire yiwe n'ishengero, n'isi itegerezwa gusa n'iyo Kristo yari afise. Akora atiziganya ngo arongore abanyavyaha ku rugero rw7ubuzima bubereye, bwo hejuru, kugira bazoronke ingororano y'uwuzonesha. Iminwa yiwe ikorwako n'ikara rizima riva ku gicaniro, kandi ashira hejuru Yesu nk'ivyizigiro vy'umunyavyaha. Abamwumva barazi ko yiyegereje Imana, asenga yinginga ashimitse. Mpwemu Yera yamumanutseko, umutima wiwe wakozweko n'inkomezi z'umuriro wo mw'ijuru. Kandi ashobora kugereranya ibintu vy'impwemu. Ahabwa ubushobozi bwo gusenyura inkomezi za Satani. Imitima irameneka igihe yerana urukundo rw'Imana, kandi benshi bituma babaza bati, «Nokora iki ngo ndonke ubugingo budashira?» «Nico gituma tutihebura, kuko dufise ubwo busuku, nk'uko twagiriwe ikigongwe. Twanse ibiteye isoni bikorerwa mu mpisho, ntitugenda mu bugunge, ntitugoreka ijambo ry'Imana, ariko kwerekana ukuri ni ko twishimagirisha mu nyonga z'Imana ku mudma w'umuntu wese. Ariko namba ubutumwa bwiza twahawe butwikirwa, butwikirwa abahona, ni bo batizera, bamwe imana y'iki gihe yahumye imitima, ngo umuco ntubakire w'ubutumwa bw'ubwiza bwa Kristo, ni we shusho y'Imana. Kuko tutigisha abantu ivyacu, ariko tubigisha ivya Kristo Yesu ko ari we Mwami, natwe yuko turi abashumba banyu ku bwa Yesu. Imana, imwe yavuze ngo umuco wake, uvuye mu mwiza, ni yo yakiye mu mitima yacu, kwerekana umuco, ni wo kumenya ubwiza bw'Imana buri mu nyonga ha Yesu Kristo.» Uko niko, iyo
[172] ntumwa yarase ubuntu n'imbabazi vy'Imana, vyerekanwa mw'iragi yashikirijwe nk'umukozi wa Kristo. Ku bwo imbabazi ntangere z'Imana, we na bene Data bari barashigikiwe mu ngorane, akababaro, n'akaga. Ntibari bashingiye ukwizera kwabo n'inyigisho ku vyifuzo vy'ababumviriza, canke ngo bahishe ukuri guhambaye kwo gukiza, kugira ngo inyigisho zabo ziryohere abantu.Bari bashikirije ukuri mu buryo bworoshe kandi bwumvikana, basengera abantu ngo bagondozwe kandi bahindukirire Imana. Kandi bari barageragеje kwigenza nk'uko bigisha, ngo ukuri bigisha gushike ku mutima w'umuntu wese.

Iyo ntumwa yarabandanije, iti «Ariko dufise ubwo butunzi mu nzavya z'ibumba, ngo ubushobozi buhebuje bube ubw' Imana, butavuye kuri twebwe.» Imana yari gushobora gukwiragiza ukuri ikoresheje abamarayika batacumuye, ariko iyi si yo nteguro yayo.

Yatoranije abantu, abantu b'intege nke, ngo babe ibikoresho vyo gushira mu ngiro imigambi yayo. Ubwo butunzi bw'agaciro k'umurengera bubitswe mu nzavya z'ibumba. Imigisha yayo itegerezwa gushikira isi iciye mu bantu. Muri bo ubwiza bwayo butegerezwa gukayanganira mu mwiza w'icaha. Mu gikorwa c'urukundo, basabwa gushikira abanyavyaha, abakene, maze bakabazana ku musaraba. Kandi mu gikorwa cabo cose, bategerezwa guha ikuzo, icubahiro n'amashimwe wa wundi ari hejuru ya vyose na bose. Avuga ivyamubayeko, Paulo yerekanye ko mu guhitamwo gukorera Kristo atasunitswe n'ukwikunda, kuko ubuzima bwiwe bwaranzwe n'imibabaro n'ibigeragezo. Yanditse ati,«Dusugerezwa impande zose, ariko ntidushika mu mbambane; turazazanirwa, ariko ntituranduka umutima; turahamwa, ariko ntiduhebwa; dukubitwa hasi, ariko ntitugwaho; imisi yose tugendana mu mubiri urupfu rwa Yesu, ngo ubugingo bwa Yesu na bwo buserukire mu mubiri wacu.»

Paulo yibukije bene Data ko nk'intumwa za Kristo, we n'abo basangiye igikorwa bama na ntaryo mukaga. Imibabaro baciyemwo yabasizemwo imvune. Yanditse ati «Twebwe abariho, na ntaryo dutangwa ngo dupfe baduhora Yesu, kugira ngo ubugingo bwa Yesu nabwo buserukire mu mubiri wacu uzopfa. Nuko rero urupfu rukorera muri twebwe, ariko ubugingo bukorera muri mwebwe.» Mu kubabazwa ku mubiri, mu kwiyima no gucumukura, aba bakozi ba Kristo bariko barishushanya n'urupfu rwiwe. Ariko, icazana urupfu muri bo cariko kizanira ubuzima bwa Mpwemu n'amagara meza Abakorinto; mu kwizera ukuri bagirwa abasangira ku bugingo budashira. Ku bwo ivyo, abigishwa ba Yesu bategerezwa kwiyubara, ngo ntibongereze, mu rwangara n'ukubura urukundo, imitwaro n'imibabaro y'abakozi b'Imana.

Paulo yarabandanije ati «ko dufise uwo mutima wizera, uboneka mu Vyanditswe, ngo Nizeye, ni co gituma mvuga; natwe nyene turizera, ni co gituma tuvuga.» Kubera yari azi ko ukuri yahawe atari ikinyoma, nta kintu na kimwe cashobora kwosha Paulo [173] kwigisha ikinyoma canke ngo ahishe ivyemezo vyo mu mutima wiwe. Ntiyashobora kurondera ubutunzi, icubahiro, canke ukwinezereza nk'uko ab'isi babikora. Naho na ntaryo yama ari mw'irinde ry'urupfu azira ukwizera, yari azi ko uwapfuye kandi akazuka azomuzura kandi akamushikiriza Data. Yavuze ati «Kuko ivyo vyose biba ku bwanyu kugira ngo ubuntu bw'Imana bwongeran-

ishwe n'ukugwira kw'abantu, bugwize ishimwe, ngo ritere Imana icubahiro.» Intumwa ntizavuze ubutumwa bwiza ngo bishire hejuru ubwabo. Ivyizigiro vyo gukiza imitima ni vyo vyabateye kwihebera iki gikorwa. Kandi ni ibi vyizigiro vyabateye kudacika intege ku bwo gutinya akaga canke imibabaro y'iki gihe.

Paulo yavuze ati «Nico gituma tutihebura, ariko naho umuntu wacu wo ku rukoba ariko arabora, umuntu wacu w'imbere yama ahinduka musha uko bukeye.» Paulo yaratahura ubushobozi bw'umwansi; ariko naho inkomezi ziwe z'umubiri zagenda zigabanuka, yamamaje ubutumwa bwiza bwa kristo bwizigirwa, kandi atiziganije. Yambaye ibirwanisho vyose vy'Imana, iyi ntwari y'umusaraba yabandanije urugamba. Ijwi ryayo rizana inkomezi ryamushingiye intahe ko yanesheje. Yahanze amaso ingororano y'ukwizera, ashira hejuru n'amajwi y'intsinzi, «Kuko amarushwa yacu ahwahutse y'akanya ka none yiyongeranije cane kudushikiriza ubwiza buremereye bw'ibihe bidashira; natwe ntituraba ku biboneka, ariko turaba ku bitaboneka: kuko ibiboneka ari ivyo igihe gito, ariko ibitaboneka bikaba ivyo ibihe bidashira.»Iyo ntumwa yasavye yinginga abavukanyi b'i Korinto kwongera kwihweza urukundo ntangere rw'Umukiza wabo. Yanditse ati «kuko muzi ubuntu bw'Umwami wacu yesu Kristo, yuko naho yari umutunzi, yihinduye umworo ku bwanyu, kugira ngo ubworo bwiwe bubatungishe.» Murazi uburebure yavuyeko yicisha bugufi, agakengerwe kadashoboka yihanganiye. Amaze kugendera mu nzira y'ukwiyanka n'ukwitanga, ntiyayiviririye gushika atange ubuzima bwiwe. Nta gahengwe kabaye hagati y'intebe y'ubwami n'umusaraba.

Intambuko ku yindi, Paulo yararandiriye, kugira ngo abazosoma ikete ryiwe bazotahure neza ibintu bidasanzwe Umukiza yabakoreye. Yerekanye kristo, ingene yari ari igihe yangana n'Imana, kandi ahabwa icubahiro n'abamarayika, maze iyo ntumwa irakomeza yerekana inzira yaciyemwo gushika amanuke ku gakengerwe katagira uko kangana. Paulo yari azi neza ko hamwe yoshobora kubumvisha ukwitanga gutangaje kw'Umwami w'ijuru, ukwikunda kwose kwosendwa mu buzima bwabo. Yerekanye ingene Umwana w'Imana yashize i ruhande icubahiro ciwe, agahitamwo ata gahato kwishira mu kiringo ca kamere y'umuntu, kandi akiyorosha nk'umusuku, akagamburuka gushika apfe, «mbere urupfu
[174] rw'umusaraba» (Ab'i Filipi 2:8), ngo aduze umuntu yaguye amukura

ku cavu akamushikana ku vyizigiro n'umunezero w'ijuru.

Iyo twize kamere y'Imana twiyumvira n'umusaraba, tubona imbabazi, ubugwaneza, n'ikigongwe kivanze n'ubutungane. Tubona hagati y'intebe y'ubwami uwufise mu biganza no ku maguru no mu rubavu ibimenyetso vy'umubabaro yihanganiye ngo yuzuze umuntu n'Imana. Tubona Data, atagira itanguriro n'iherezo, yicaye mu muco utegerwa, ariko atwakira mu maboko yiwe biciye mu bikorwa vy'Umwana wayo. Igicu c'uguhora cazana gusa amagorwa n'ukwihebura, kirabiwe mu muco uva ku musaraba gihishura amajambo yanditswe n'Imana: Baho, munyavyaha, baho. Mwa mitima yihanye, mwe, ni mubeho. Naratanze indishi. Twitegereje Kristo, twicara ku musenyi w'urukundo rutagira akagero. Twifuza kuvuga urwo rukundo, tukabura amajambo twokoresha. Turazirikana ubuzima bwiwe kw'isi, ikimazi yadutangiye, igikorwa ciwe mw'ijuru nk'Umwitsa wacu, n'amazu ariko arategurira abamukunda, maze tukavuga dutangara tuti, Mbega ubuntu bwo hejuru no hasi vy'urukundo rwa Kristo? Iki ni co kirimwo urukundo, si uko twakunze Imana, ariko ni uko ariyo yadukunze, igatuma Umwana wayo kuba impongano y'ivyaha vyacu.» «Murabe urukundo uko rungana Data wa twese yatugiriye, ko twitwa abana b'Imana.» 1 Yohana 4:10; 3:1.

Mu mwigishwa w'ukuri wese, uru rukundo, rwaka ku gicaniro c'umutima nk'umuriro mweranda. Kw'isi ni ho urukundo rw'Imana rwahishuriwe biciye muri kristo. Kw'isi ni ho abana bayo bategerezwa kwerekana uru rukundo mu buzima bwabo butagira agasembwa. Uku niko abanyavyaha bazoyoborwa ku musaraba ngo bitegereze Umwagazi w'intama w'Imana.

## Ikigabane ca 32: Ishengero Ritanga

Mw'ikete ryiwe rya mbere ku Bakorinto, Paulo yahaye abizera inyigisho zijanye n'ingingo ngenderwako rusangi zerekeye gushigikira igikorwa c'Imana mw'isi. Igihe yandika avuga ivy'ibikorwa vyiwe yabakoreye nk'intumwa, yabajije ati: «Ninde yigeze kwitunga ari umusoda? Ni nde yotera uruzabibu ntarye inzabibu zarwo? Canke ni nde yoragira ubusho, ntabunywe? Mbega ivyo mdabivuze mu buryo bw'abantu, canke ivyagezwe vyo ntibivuga bityo? Kuko handitswe mu vyagezwe vya Mose, ngo ntimuze murumye umunwa w inka iriko irasekura ingano. Mbega inka ni zo Imana ibabaye? Canke se yabivuze ku bwacu? Egome, vyanditswe ku bwacu; kuko umurimyi akwiye kurima afise ivyizigiro, kandi umusekuzi akwiye gusekura yizigiye ko azohabwako.
[175] «Mbega ko twababivyemwo ivyo impwemu, none ni ibikomeye ko twokwimbura ivyanyu vy'umubiri? Abandi namba baravyemerewe kuri mwebwe, mbega ntitubaruta cane? Ariko ntitwarwaniye ivyo twemerewe, yamara twihanganira vyose, kugira ntituzane icotera inzitizi ubutumwa bwiza bwa Kristo. Ntimuzi ko abakora ibikorwa vy'ivyera barya ivyo urusengero, kandi ko abakora ivyo igicaniro basangira n'igicaniro? Kandi n'Umwami wacu ni ko yategetse ko abavuga ubutumwa bwiza batungwa n'ubutumwa.» 1 Ab'i Korinto 9:7-14.

Hano, iyo ntumwa yavuga ivyo integuro y'Umwami yo kubungabunga abaherezi bakora mu rusengero. Abari bararobanuwe ku bwo iki gikorwa babeshwaho n'abavandimwe, abo bakorera ngo bahezagirwe mu vyo impwemu. «Kandi mu bana ba Lewi, ivyagezwe bitegeka yuko abahawe ubuherezi batangisha abantu ikigiracumi.» Abaheburayo 7:5. Umuryango wa Lewi watowe n'Uhoraho ngo bakore ibikorwa vyera bijanye n'urusengero n'ubuherezi. Ku baherezi handitswe ngo «Uhoraho Imana yanyu yamutoranije... ngo baze bahore bakora igikorwa c'ubuherezi mw'izina ryiwe.» (Gusubira mu Vyagezwe 18:5.) Ikigiracumi c'inyungu zose Uhoraho yakigize inyegu yayo, kandi kugumya

ikigiracumi vyaharurwa n'Imana nk'ubusuma. Uyu mugambi wo gushigikira ivugabutumwa ni wo Paulo yisunze igihe yavuga, ati «Kandi n'Umwami wacu niko yategetse ko abavuga ubutumwa bwiza batungwa n'ubutumwa.» Kandi munyuma yandikira Timoteyo, iyo ntumwa yavuze iti «Umukozi akwiye ingero yiwe.» 1 Timoteyo 5:18. Kuriha ikigiracumi yari integuro y'Imana yo gushigikira igikorwa cayo. Ingabire n'amashikanwa vyagenywe n'Imana. Mu gihe c'Abayuda abantu bigishijwe kwijukira umutima wo gutanga, haba mu gushigikira igikorwa c'Imana canke mu gufasha abakene. Mu bihe bidasanzwe harabaho amashikanwa umuntu yatanga nk'uko avyiyumvamwo. Mu gihe co kwimbura n'ukwenga, imishuzo y'umurima , ingano, vino, n'amavuta, vyaratangwa nk'ishikanwa ry'Uhoraho. Ivyasigaye mu murima mw'iyimbura, no mu mfuruka z'umurima vyaheberwa aboro. Imishuzo y'ubwoya igihe intama zamobwa, intete igihe ingano zagenywa, vyegukira Imana. Ni ko vyari no ku mfura z'ibitungwa vyose, kandi amahera y'impongano yaratangwa ku bwo abana b'imfura b'abahungu. Imishuzo yashikanwa imbere y'Uhoraho mw'ihema ryera kandi yarihariwe abaherezi.

Muri iyi nteguro yo gutanga, Uhoraho yashaka kwigisha isirayeli ko muri vyose ategerezwa kuba nyambere. Gutyo bibutswa ko Imana ari yo Segaba w'imirima yabo, amasho yabo mato na manini; ko ari We abarungikira izuba n'imvura bikuza kandi bikeza imirima. Ko ico bari bafise cose cari iciwe; bari abazezwabintu b'ivyiwe. Si umugambi w'Imana ko Abakristo, bagiriwe amahirwe aruta ayo Abayuda, batanga bike kuruta ivyo Abayuda batanga. Umukiza yavuze ati «Uwahawe vyinshi wese azobazwa vyinshi.» [176]
Luka 12:48. Ugutanga kwasabwa ku Baheburayo kwagirira akamaro kanini igihugu cabo; uyu musi igikorwa c'Imana gikwiye kw'isi yose. Kristo yashize mu maboko y'abigishwa biwe ubutunzi bw'ubutumwa bwiza, kandi ni bo yahaye igikorwa co gushikiriza amahanga yose inkuru nziza y'agakiza. Nta nkeka, dusabwa vyinshi kuruta ivyasabwa Isirayeli ya kera.Ubwo igikorwa c'Imana caguka, imihamagaro yo gufasha igikorwa c'Imana izoza kenshi kenshi. Kugira ngo iyi mihamagaro yumvirwe, Abakristo bategerezwa kwumvira rya tegeko, «Muzane mu bubiko ibigiracumi bishitse, kugira ngo inzu yanje ibemwo ivyo kurya.» Malaki 3:10. Iyaba abivuga ko ari Abakristo bozaniye Imana ibigiracumi n'amashikanwa yabo,

ububiko bwayo bwokwuzuye. Ntivyobaye ngombwa ngo baronde ibihe vyo kwinezereza, imikino y'itombora canke imisi mikuru y'ukwiryohererwa kugira ngo bayikoreshe mu kurondera amahera yo gushigikira ubutumwa bwiza.

Abantu bakwegakwegerwa gukoresha ubutunzi bwabo mu kwikunda, mu gushimisha inda zabo, kwambara, canke gutaka amazu yabo. Ku bwo ivyo bintu, abanywanyi benshi b'ishengero ntibatinya gusohora amahera, mbere no gusesagura. Ariko iyo basabwe kuzana mu bubiko bw'Uhoraho, ngo bateze imbere igikorwa ciwe mw'isi, barondera urwitwazo. Kumbure babonye ata kundi bogira, bazana udufaranga tw'inticantikize, turi musi cane y'ivyo benshi basesagura ku bidakenewe. Ntiberekana vy'ukuri urukundo bakunda igikorwa ca kristo, ntibitayeho gukiza imitima. Nta gitangaje kuri abo bantu kubona ubuzima bwabo ari ibikuri! Umuntu umutima wiwe wuzuye urukundo rwa kristo, ntazobona gusa ko gutanga ari ibwirizwa, ahubwo azobikora anezerewe, ngo afashe iterambere ry'igikorwa kiruta vyose, cera rwose cahawe umuntu-igikorwa co kwereka isi ubutunzi bw'urukundo, imbabazi n'ukuri.

Umutima wo kwifuza ni wo uyobora abantu kwikwegerako ivyegukira Imana, kandi uyu mutima urasesema Imana uyu musi, nk'uko wayisesema igihe yavugira mu wo yavugisha yiyamiriza ubwoko bwayo iti, «Mbega umuntu yogunga Imana? Ariko mwebwe mwarangunze. Yamara muravuga, muti Twakugunze ibiki? Mwangunze ikigiracum: n'amashikanwa. Wa muvumo murawuvumwe: Kuko ihanga ryosc uko mungana mwarangunze.» Malaki 3:8,9.

Umutima wo gutanga ni umutima w'ijuru. Uyu mutima wigaragaje cane ku kimazi ca Kristo ku musaraba. Ku bwacu Data yatanze Umwana wiwe w'ikinege; kandi Kristo, amaze gutanga ivyo afise vyose, yitanze ubwiwe, ngo umuntu arokoke. Umusaraba w'i Kaluvari utegerezwa guhamagarira umwigishwa w'Umukiza wese gutanga. Itegeko riri aha ni gutanga, gutanga, Uwuvuga ko ahora muri We, akwiye kugenda nk'uko uwo yagenda.» 1 Yohana 2:6

[177] Ku rundi ruhande, umutima wo kwikunda ni umutima wa Satani. Itegeko ryigaragaza mu buzima bw'abakunda isi ni kuronka, kuronka. Gutyo, bibwira ko bazoronka umunezero no kudibama, ariko icamwa c'imbuto babivye ni ubutindi n'urupfu. Bazoturura kugumya uruhara Imana yiharije umusi Imana izorambirwa guhezagira abana bayo, niho bazogondozwa bagaheba kwigarurira

umugabane Imana yiharije. Ntibategerezwa gusa gusubiza Uhoraho uruhara rumwegukira, ahubwo bari bakwive kuzana mu bubiko bwiwe amashikanwa yo gushima atubutse. Bakwiye guhebera Umuremyi imishuzo y'ivyimburrwa vyabo- vyiza vyo mu butunzi bwabo, ibikorwa vyabo vyiza vyeranda. Gutyo, bazokwunguka imihezagiro myinshi. Imana ubwayo izohindura imitima yabo nk'umurima uvomerewe, amazi yawo adakama. Kandi isarura ni ryagera, imikama bazoshobora kuzanira Umwami izoba impera y'italanto zabo bakoresheje ata kwikunda.

Intumwa zatoranijwe n'Imana, ziri ku kivi, ntizitegerezwa kugoberwa kuja mu rugamba ku mufuko wabo, badafashijwe na bene Data bafise umutima w'impuhwe no gushigikira. Ni uruhara rw'abanywanyi b'ishengero gutanga batitangiriye itama ngo bashigikire abo bantu baretse ibikorwa vyabo ngo bihebere igikorwa co kwamamaza ubutumwa. Iyo abavugabutumwa b'Imana bashigikiwe, igikorwa cayo gitera imbere cane. Ariko, iyo, bivuye ku kwikunda kw'abantu, banse gushigikira, ibiganza vyabo bicika goyigoyi, kandi kenshi ntibaba bagifashije igikorwa. Uburake bw'Imana buziriringira abantu biyita abigishwa bayo, ariko bagatuma abakozi bihebeye ubutumwa guterwa n'ubukene kandi bari mu gikorwa cayo. Abantu bikunda bazosabwa kwisobanura, atari gusa ku buryo bakoresheje nabi amahera y'Uhoraho, ahubwo no ku gahinda n'ukuvunika umutima bateje abasuku biwe b'intungane. Abahamagarirwa igikorwa c'ivugabutumwa, maze bagaheba vyose ngo binjire mu gikorwa c'Imana, bategerezwa, ku bwo ukwitanga kwabo kuronka ibibafasha n'ibifasha imiryango yabo.

Mu bisata bitari bimwe vy'ibikorwa bisanzwe, abakozi bashobora gukoresha ubwenge n'amaboko yabo bakaronka imishahara myiza. Mbega igikorwa co gukwiragiza ukuri, n'ukuyobora imitima kuri Kristo, ntigihambaye kuruta igikorwa gisanzwe ico ari co cose? Duharura agaciro k'ibikorwa vy'umubiri, tukabona kwerekana agaciro k'ivyo mw'ijuru tugereranije n'ivyo isi. Kugira ngo mu bubiko habeho ivyo gushigikira ivugabutumwa mw'isi hose, birakenewe ko abantu b'Imana batanga banezerewe kandi bagatanga amashikanwa atubutse. Ni umutwaro w'abavugabutumwa kwama na ntaryo bereka amashengero ibikenewe mu gikorwa c'Imana, no kubigisha gutanga amashikanwa atubutse. Iyo ibi bifashwe minenerwe, n'amashengero ntatange ivyo gufasha abandi, si igikorwa c'Uhoraho

[178] gisinzikara gusa, ahubwo n'imigisha yoje ku bizera ica iburizwayo. N'aboro bose na bo nyene bategerezwa gushikanira Imana. Bategerezwa gusabikanya ubuntu bwa Kristo mu kwiyanka kugira ngo bafashe abari mu bukene buruta ubwabo. Ishikanwa ry'umworo, rivuye mu kwiyanka, riduga imbere y'Imana nk'umubavu umota neza. Kandi ikintu cose umuntu akora mu kwitanga gikomeza umutima wo gutanga w'uwo muntu, kikamwegereza wa wundi, naho yari umutunzi yigize umworo ku bwacu, ngo muri We duhinduke abatunzi.

Igikorwa ca wa mupfakazi yahevye amasenge abiri- Ivyo yari afise vyose- mu bubiko, canditswe ngo gitere intege abo bantu barwana n'ubukene, ariko bacifuza gufashisha igikorwa c'Imana amashikanwa yabo. Kristo yeretse abigishwa biwe uwo mugore, yari yatanze «ibimutunze vyose.» Mariko 12:44. Yaharuye ko ishikanwa ryiwe rifise agaciro kuruta ibihera vyinshi vyashikanwa n'abo gutanga kwabo kutabasavye kwiyanka. Ku murengera bari bafise bari bakuyeko agace gatoya. Kugira ngo atange ishikanwa ryiwe, uwo mupfakazi yiyambuye n'ivyomufashije kubaho, yizera ko Imana izomuha ivyo azokenera ejo. Ku bw'uwo, Umukiza yavuze, ati «Ndababwire ukuri, uyu mupfakazi w'umworo ashikanye ibirengeye ivyo bose batereye mu masandugu.» Umurongo wa 43. Gutyo rero yigishije ko agaciro k'ishikanwa kadahagaze ku gitigiri, ahubwo ko gahagaze ku co umuntu asigaranye, n'umutima wasunitse uwatanze. Intumwa Paulo mu gikorwa yakorera mu mashengero ntiyahumeka mu gushimangira mu mitima y'abizera basha icifuzo co gukora vyinshi ku bwo igikorwa c'Imana. Kenshi yarabinginga ngo bimenyereze gutanga. Igihe yabwira abarongozi b'ishengero rya Efeso ivyo ibikorwa yakoreye muri bo, yavuze ati, «Nabahaye akarorero muri vyose, yuko mu buruhe nk'ubwo, mukwiye gufasha abadakomeye, no kwibuka amajambo y'Umwami Yesu, ingene ubwiwe yavuze, ati Gutanga kuzana umugisha kuruta guhabwa.» Yandikiye Abakorinto ati, «Uwubiba nke, azokwimbura bike, uwubiba vyinshi azokwimbura vyinshi. Umuntu wese atange nk'uko abihisemwo mu mutima wiwe, kuko Imana ikunda uwutanga anezerewe.» Ivyakozwe n'Intumwa 20:35; 2 Ab'i Korinto 9:6, 7.

Hafi abizera b'i Makedoniya bose bari aboro mu vy'isi, ariko imitima yabo yari yuzuye urukundo bakunda Imana n'ukuri, kandi batanze banezerewe ngo bashigikire ubutumwa bwiza. Igihe

amashikanwa yegeranywa mu mashengero y'abanyamahanga yo gufasha abizera b'Abayuda, ugutanga kw'abizera b'i Makedoniya kwatanzweko akarorero ku yandi mashengero. Yandikira abizera b'i Korinto, intumwa Paulo yabahamagariye kwihweza «ubuntu bw'Imana amashengero y'i Makedoniya yagiriwe; ingene mu kugeragezwa n'amarushwa menshi, umunezero wabo w'akaburarugero, n'ubworo bwabo butagira iyo buherwa, vyarushirije kuzana ubutunzi bw'ivyo ubuntu bwabo. Ku bwabo baratanze nk'uko bashoboye, .... kandi n'ukurusha ivyo bashoboye, badusaba binginga cane kubatera [179] iteka kugira ngo bafatanye n'abagaburira abera.» 2 Ab'i Korinto 8:1-4. Kwemera kwitanga kw'abizera b'i Makedoniya kwavuye ku mutima wo kwiyegurira Imana. Basunitswe na Mpwemu w'Imana, «babanje kwitanga biha Umwami wacu Yesu» (2 Ab' i Korinto 8:5.), maze baboneraho gutangana umutima ubikunze ku vyabo ngo bashigikire ubutumwa bwiza. Ntivyabaye ngombwa ngo babahatire gutanga; ahubwo banezerejwe n'uwo mugisha wo kwiyima n'ibikenwe vyo kubatunga, ngo bashobore gufasha abandi bari mu bukene. Igihe intumwa yababuza gutanga, barayigobereye ngo yakire ishikanwa ryabo. Mu kwiyorosha kwabo, mu bwizigirwa bwabo, no mu rukundo bakunda bene Data, bariyimye banezerewe, maze baba akarorero ko gutanga.

Igihe Paulo yarungika Tito i Korinto kuremesha abizera baho, yamusavye gukomeza iryo shengero mu buntu bwo gutanga, maze mw'ikete yandikiye abizera ashiramwo n'umuhamagaro wiwe bwite. Yabinginze ati, «Nk'uko murushiriza kugira vyose, ukwizera, n'amajambo, n'ubwenge, n'umwete mwinshi, n'urukundo mudukunda, ni murushirize no kugira ubwo buntu na bwo. Nuko none mushitse no kubikora, kugira ngo nk'uko mwakunze kuvyemera, abe ariko mubishitsa ku vyo mufise. Kuko iyo hari umutima ukunze, wemerwa ku vyo umuntu afise, si ku vyo adafise. «Kandi Imana ishobora kubasesekazako ubuntu bwose, kugira ngo murushirize gukora ivyiza vyose: . . . namwe muzotungishwa muri vyose, ngo mugire ubuntu bwose, butuma dushimisha Imana.» 2 Ab'i Korinto 8 :7,11,12; 9:8-11.

Gutanga kutarimwo ukwikunda kwazaniye ishengero rya mbere umunezero utangaje; kuko abizera bari bazi ko utwigoro twabo twafasha gushikanira ubutumwa bwiza abari mu mwiza. Ugutanga kwabo kwerekana ko ubuntu bw'Imana baronse butabaye impfagusa.

Uko gutanga kwari kuzana iki kiretse kubazanira ukwezwa kwa Mpwemu? Mu maso y'abizera n'abatizera, cari igitangaza c'ubuntu. Kuroranirwa mu vya Mpwemu bifitaniye isano rinini no gutanga Rukristo. Abigishwa ba Kristo bari bakwiye kunezererwa amahirwe yo kugaragaza mu buzima bwabo umutima wo gutanga w'Umukiza wabo. Ubwo bashikanira Umwami bazi neza ko ubutunzi bwabo bubatanga imbere mu birimba vyo mw'ijuru. Abantu boba bifuza kubika ubutunzi ahadata? Nibabushire mu biganza vyiremetse ibimenyetso vy'umusaraba. Boba bashaka kunezerererwa ivyabo? Nibabikoreshe mu guhezagira abakene n'abababaye. Boba bifuza kwongereza ubutunzi bwabo? Nibumvire itegeko ry'Imana, «Wubahishe Uhoraho ibintu vyawe, bo n'umushuzo w' ivyeze vyose: Niho ibigega vyawe bizokwuzura vyongerekane, kandi n'amato yawe azosesekara imitobe.» Imigani 3:9,10. Nibagumya ubutunzi bwabo ku bwo kwikunda, bizobazanira ubuhombe bw'ibihe
[180] bidashira. Ariko nibaha Imana ubutunzi bwabo, uhereye ico gihe, buzorangwako ikidodo c'Imana. Bazoshirwako ikidodo ntayegayezwa. Imana ivuga iti, «Murahiriwe, yemwe ababiba mu biyaga vy'amazi yose, mukarekura inka n'indogoba kugenda umwagambo.» Yesaya 32: 20. Gushikanira na ntaryo Imana ku ngabire yaduhaye ngo bifashe aho bikenewe mu gikorwa c'Imana canke abakeneye ubufasha bwacu, ntibizana ubukene. «Umwe atanga isabagire, akarushiriza kwunguka, uwundi yikumirako ivyo yari akwiye gutanga, bimukwegera ubukene.» Imigani 11:24. Umubivyi yongereza imbuto yiwe mukuyisanzaza. Uku niko bimeze no kubasabikanya mu bwizigirwa ingabire z'Imana. Mu gutanga, bongereza imigisha yabo. Imana yatanze isezerano: «Mutange, namwe muzohabwa; ingero nziza, itsindagiye, inyingishe, isesekaye, niyo bazobaha mu co muteze.» Luka 6:38.

# Ikigabane ca 33: Gukorera Mu Ngorane

Naho Paulo yitwararika gushikiriza Abakristo biwe inyigisho yuzuye y'Ivyanditswe Vyera ijanye n'uburyo bubereye bwo gushigikira igikorwa c'Imana, naho kandi yavuga k'umukozi w'ubutumwa bwiza afise «ubushobozi bwo kwemererwa kureka gukora»(1 Ab'i Korinto 9:6) ibikorwa bisanzwe ngo yibesheho atarinze kuzera inze, kenshi mu gihe yakorera mu bisagara binini biteye imbere vyaramusaba ko akora ibikorwa vy'umwuga ngo yibesheho. Mu bayuda, ibikorwa vy'iminwe ntivyaharurwa nk'ibintu bidasanzwe canke bikengeretse. Ku bwa Mose Abaheburayo bari barigishijwe kumenyereza abana babo ibikorwa vy'amaboko, kandi vyaharurwa nk'icaha kureka urwaruka ngo rukure rutazi umwuga. Naho umwana yarererwa ibikorwa vyeranda, kumenya gukora ibikorwa vya misi yose babifata nk'ikintu ca nkenerwa. Umusore wese, yaba afise abavyeyi batunze canke bakenye, yigishwa gukoresha amaboko yiwe. Abavyeyi birengagiza guha abana babo indero bene iyo baboneka nk'abatumviye impanuro z'Imana. Ku bwo uwo muco rero, Paulo akiri muto yari yarize umwuga wo kujisha amahema. Imbere y'uko aba umwigishwa wa Kristo, Paulo yari umuntu ahambaye kandi ntiyari akeneye gukoresha amaboko yiwe kugira ngo abeho. Ariko mu nyuma, amaze gukoresha uburyo bwiwe bwose ngo ateze imbere igikorwa ca Kristo, vyaramusavye rimwe na rimwe kwikora ku mwuga wiwe kugira ngo aronke ibimutunga. Niko vyagenze cane cane igihe yakorera mu turere abantu batatahura neza imvo yamutumye aba umuvugabutumwa.

Muri Tesalonike niho dusoma ubwa mbere uko Paulo yakoresheje amaboko yiwe ngo ashigikire igikorwa ariko aravuga ijambo ry'Imana. Igihe yandikira abizera baho, yabibukije ko «yari kuba yarashoboye kubaremera,» kandi yongerako ati: «Bene Data, muribuka uburuhe bwacu n'ubucumukure; twababwira ubutumwa [181]
bwiza bw'Imana twikenurira umurango n'ijoro, kugira ngo ntihagire uwo muri mwebwe turemera.» 1 Ab'i Tesalonike 2:6, 9. Kandi,

mw'ikete ryiwe rya kabiri yabandikiye, yavuze ko we n'abo bisarigiye igikorwa igihe bari muri bo «batarya ivyokurya vy'umuntu n'umwe ku busa.» Yanditse ati: «Twakora ijoro n'umurango ngo ntitugire umuntu muri mwebwe tugora: Si uko tutavyemerewe, ariko ni ukugira ngo tubahe akarorero ngo mutwigane.» 2 Ab'i Tesalonike 3:8,9.

I Tesalonike Paulo yari yahuye n'abantu banka gukoresha amaboko yabo. Abantu nk'abo ni bo yahavuye yandikako avuga ati: «Hariho bamwe muri mwebwe bagenda basaragurika, bama bineganegera bakita mu bitabakwiye. Ariko abameze batyo turabagera tubahanura ku bwo Umwami wacu Yesu Kristo, gukora ibikorwa batekereje, babone kurya ivyo bironkeye ubwabo.» Igihe yariko akorera i Tesalonike, Paulo yaritwararitse guha abantu nk'abo akarorero keza. «Kuko tukiri kumwe namwe twabategetse iki, rgo umuntu wese niyanka gukora ntakarye.» Imirongo ya 11, 12, 10. Muri buri runganwe Satani yama arondera gusinzikaza utwigoro tw'abasuku b'Imana mukwinjiza mw'ishengero abantu basaragurika. Uku niko vyabaye mu gihe ca Paulo, kandi ni nako vyagenze mu binjana vyakurikiye ighe c'Ubugorozi. Wikirife, Luteri, n'abandi benshi bahezagiye isi ku bwo ijunja ryabo n'ukwizera kwabo, bahuye n'amayeri umwansi akoresha arondera kugusha abantu basaragurika mu mwete w'indenzarugero, batigerera, batejejwe. Abantu b'inzimizi bigishije ko gushika ku bweranda bw'ukuri bishira ubwenge hejuru y'ivyiyumviro vy'isi kandi bikabuza abantu igikorwa cose. Abandi nabo, barengera akarimbi imirongo imwe imwe ya Bibihya, bigishije ko gukora ari icaha-ko Abakristo badakwiye kwiyumvira ivyo ukubaho kwabo canke imiryango yabo, ngo ahubwo bakwiriye kwihebera ibintu vy'impwemu gusa. Inyigisho n'akarorero k'intumwa Paulo vyatunga urutoke ivyo vyiyumviro vy'indenzarugero.

Paulo ntiyabeshejweho n'ibikorwa vy'amaboko yiwe ijana kw'ijana igihe yari i Tesalonike. Mu nyuma, igihe yandika ivyamubayeko muri ico gisagara, yandikiye abizera b'i Fihpi yemeza ivyo bamuhaye igihe yari i wabo, avuga ati, «N'i Tesalonike naho mwandungikiyeyo ivyo kumara ubukene, si rimwe ni kabiri kose.» Ab'i Fihpi 4:16. N'ubwo yaronse ubwo bufasha, yaritwararitse guha abanyatesalonike akarorero ko gukorana ubwira, ngo ntihagire n'umwe amurega ko ahahamiye ibintu, kandi ngo abo bari bafise

ivyiyumviro bidatomoye ku vyerekeye ibikorwa vy'amaboko bagondoreshwe akarorero, atari amajambo gusa. Igihe Paulo yagendera Korinto, yasanze ari hagati y'abantu bikeka cane ba kavantaraa. Abagiriki bo ku nkengera y'ibahari bari abacuruzi rurangiranwa. Bari barize neza ivyo urudandazwa, ku buryo vyashitse aho bizera ko inyungu ari ikimenyetso c'ubugororotsi, kandi ko kuronka amahera, [182] haba mu nzira zemewe canke z'uburyarya, vyari vyemewe. Paulo yari azi neza ingeso zabo, ku buryo atashobora kubaha akaryo ko kumurega ngo yavuga ubutumwa bwiza ngo yironkere ubutunzi. Yari afise uburenganzira bwo gushigikirwa n'Abanyakorinto bumvise ubutumwa bwiwe; ariko yaranse gukoresha ubwo burenganzira, kugira ngo akamaro kiwe n'intsinzi yiwe nk'umukozi w'ubutumwa bwiza ntibitukwe n'abantu bikeka ko yavuga ubutumwa bwiza ku bwo kurondera inyungu. Yarondeye gukuraho ivyiyumviro bitari vyo, ngo inkomezi z'ubutumwa bwiwe ntizitakare.

Bidatevye amaze gushika i Korinto, Paulo yabonye «Umuyuda yitwa Akwila. Amamuko yiwe ni i Ponto, yari avuye mu Butaliyano muri iyo misi, bo n'umugore wiwe Purisikila.» Abo «bari bahuje nawe ubuhinga.» Bari birukanywe n'itegeko rya Kalaudiyo, yari yategetse Abayuda bose kuva i Roma. Akwila na Purisikila bari baje i Korinto, batangura ibikorwa vyabo vyo kujisha amahema. Paulo abaza ivyabo, maze yumvise ko bubaha Imana kandi barondera kwikingira ingeso mbi zari zibazungurutse, «abana na bo, barakorana. . . . Maze aharira n'abaho mw'isinagogi amasabato yose, ngo yemeze Abayuda n'Abagiriki.» Ivyakozwe n'Intumwa 18:2-4. Nyuma y'aho, Sila na Timoteyo basanze Paulo i Korinto. Aba bavandimwe bazanye amahera avuye mu mashengero i Makedoniya, yo gushigikira igikorwa.

Mw'ikete ryiwe rya kabiri yandikiye abizera b'i Korinto yanditse amaze kuhashinga ishengero rikomeye, Paulo yakubise agatima mpembero ku buryo yabanye na bo. Yabajije ati «Canke mbega naracumuye kuko nicishije bugufi ngo mushirwe hejuru, ndababwiye ubutumwa bwiza bw'Imana ku busa? Nasahuye ayandi amashengero ndayaka ingero, kugira ngo nkorere mwebwe, kandi aho nari kumwe namwe ngakena, sinagize uwo ngora: kuko bene Data bavuye i Makedoniya bamaze ubukene. Uko ukuri kwa Kristo kuri muri jewe, ntawuzombuza kwirata ntyo mu ntara zo muri Akaya.» 2 A'i Korinto 11:7- 10.

Paulo ababwira ko impamvu yigenjeje atyo i Korinto kwari ukugira ngo ntahe akaryo «abagomba inyanduruko.» 2 Ab'i Korinto 11:12. Ubwo yari yakoze igikorwa co kujisha amahema, ntivyamubujije kandi kuvuga ubutumwa mu bwizigirwa. We ubwiwe avuga ivyo ibikorwa vyiwe, ati «Ni ukuri ivyerekana intumwa vyakorewe hagati yanyu mu kwihangana kwose, ni vyo bimenyetso n'ibitangaza n'ibikorwa bikomeye.» Kandi arongera ati «Ayandi mashengero yabarushije iki, atari uko jewe ubwanje ntababereye umutwaro? Mumparire ico caha! Ehe niteguye kuza i wanyu ubugira gatatu; sinzobabere umutwaro: kuko atari ivyanyu ndondera ariko
[183] ari mwebwe ubwanyu ndondera. . . . Ku bwanje nzonezerwa cane gutanga ivyanje, no kwitanga rwose, nitangira ubugingo bwanyu.» 2 Ab'i Korinto 12:12-15.

Mu gihe kirekire yamaze avuga ubutumwa muri Efeso, aho yamaze akora ivugabutumwa ry'agakura muri ako karere, Paulo yongeye kandi akora umwuga wiwe. Muri Efeso, co kimwe no muri Korinto, iyo ntumwa yanezerejwe n'ukubana na Akwila na Purisikila, bari bamuherekeje asubira muri Asiya mu mpera y'urugendo rwiwe rwa kabiri aja kuvuga ubutumwa. Hari bamwe bacishijemwo ijisho Paulo kubera akoresha amaboko yiwe, bavuga ko bitajanye n'igikorwa co kuvuga ubutumwa. Kubera iki Paulo.. umuvugabutumwa rurangiranwa, yafatanya ibikorwa vy'amaboko no kuvuga ijambo ry'Imana? Mbega umukozi ntabereye impembo yiwe? Kubera iki yata umwanya ajisha amahema, umwanya wagaragara kuri bose ko yashobora kuwukoresha neza mu bundi buryo!

Ariko Paulo ntiyabona ko ari uruhombo umwanya yakoresheje atyo. Ubwo yakorana na Akwila yagumije imigenderanire n'Umwigisha Mukuru, ntiyatakaje akaryo ko gushingira intahe Umukiza, mbere no gufasha abari mu bukene. Ubwenge bwiwe bwavoma kure ubumenyi mu vy'impwemu. Yahaye abo bisangiye igikorwa inyigisho mu bintu vy'impwemu, kandi yatanze akarorero k'umuntu akorana ubwira. Yari umukozi w'ubwenge kandi yihuta, afise umwete mu bikorwa, «akovya mu mutima akorera Umwami.» Abaroma 12:11. Ubwo yakora umwuga wiwe, iyo ntumwa yashikira umugwi w'abantu bitari gushoboka ko bashikirwa mu bundi buryo. Yeretse bagenziwe ko ubukerebutsi mu bikorwa vy'utugenegene n'ubuhinga ari ingabire y'Imana; Imana itanga ingabire bo n'ubwenge bwo kuyikoresha bubereye. Yigishije ko no

mu buzima bwa misi yose Imana itegerezwa guhabwa icubahiro. Ibikorwa vyiwe biruhisha vy'amaboko ntivyamubujije ko yitaho ivyo asabwa nk'umuvugabutumwa wa Kristo.

Rimwe na rimwe Paulo yakora ijoro n'umutaga, atari ku bwo kwifasha we ubwiwe gusa, ahubwo ari ukugira ngo afashe bene Data bakora igikorwa kimwe na we. Yasabikanije uburyo bwiwe na Luka, kandi afasha Timoteyo. Vyarashika agasonza, ngo afashe abandi bazigirijwe n'ubukene. Ubuzima bwiwe ntibwari ubwo kwikunda. Agira arangize igikorwa ciwe, igihe yavugana n'abakuru b'i Efeso abasezera, i Mileto, yashoboye kubereka intoke ziwe zacumukuye; maze avuga ad, «Ntaco nifuje, ari ifeza, ari izahabu, ari ivyambarwa vy'umuntu n'umwe. Ubwanyu murazi ko aya maboko yanje yankenurana ivyo nkenye n'abo turi kumwe. Nabahaye akarorero muri vyose, yuko mu buruhe nk'ubwo, ari ko mukwiye gufasha abadakomeye, no kwibuka amajambo y'Umwami Yesu, ingene ubwiwe yavuze, ati «gutanga bizana umugisha, kuruta guhabwa.» Ivyakozwe n'Intumwa 20:33-35.

Abavugabutumwa ni bumve ko bacumukura kandi bakiyima mu gikorwa ca Kristo, nibagendere mu vyiyumviro inzu y'uruganda Paulo yakoreramwo. Ni batahure ko igihe uyu muntu, yatoranijwe n'Imana ariko akora amahema ariko arakorera umukate awuronka awukwiriye ku bwo ibikorwa vyiwe nk'intumwa. Gukora ni umuhezagiro, ntabwo ari umuvumo. Umutima w'ubunebwe wonona ubweranda kandi ukababaza Mpwemu wTmana. Iriba ridatemba rironona, ariko umugezi Wumusarara ukwiragiza amagara meza n'umunezero mu gihugu. Paulo yari azi ko abakengera ibikorwa vy'amaboko bidatevye bazocika intege. Yifuza kwigisha abavugabutumwa bakiri bato ko mu gukoresha intoke zabo mu kumenyereza imisoso n'imitsi yabo, bazokomera bashobore kwihanganira imiruho n'ukwiyima bibarindiriye mu murima w'ivugabutumwaa. Kandi yatahuye ko inyigisho ziwe zobura ubuzima n'inkomezi igihe adakoresheje neza impande zose. [184]

Umunebwe atakaza akamenyero ntangere karonkwa n'umuntu yimenyereje ibikorwa vy'ubuzima busanzwe. Si bake, ahubwo ni ibihumbi n'ibihumbi vy'abantu babayeho gusa kwakira imigisha Imana ibasesekazako ku bwo imbabazi zayo. Bibagira kuzanira Uhoraho amashikamwa y'ishimwe ku butunzi yababikije. Bibagira ko mu gukoresha mu bwenge italanto babikijwe bategerezwa kuba abim-

buzi kandi bakaba n'abafunguzi. Iyaba batahura igikorwa Umwami yifuza ko bakora nk' intoke zo kumufasha, ntibokwirengagije igikorwa bajejwe. Si abiyumva bose ko bahamagariwe kuvuga ubutumwa bakwiye bo n'imiryango yabo kuzera na ntaryo kw'ishengero amahera yo kubashigikira. Hari akaga ku bantu bamwe bataramenyera igikorwa ko bashobora kwononekara ku bwo guhendahendeshwa ubufasha n'ububeshi, kwama bateze ko babashigikira ata kigoro nabo bagize. Uburyo bugenewe kwagura igikorwa c'Imana, ntibukwiye kuyongobezwa n'abantu bifuza kuvuga ubutumwa ngo baronke ibibafasha, gutyo bakabatera guhahamira ubuzima bwo kwikunda n'ubwo kwidibamira.

Abasore bifuza gukoresha ingabire zabo mu gikorwa co kuvuga ubutumwa, bazokura icigwa gihambaye mu karorero ka Paulo i Tesalonike, i Korinto, Efeso, no mu bindi bibanza. Naho yari umuhinga mu kuvuga, kandi yatowe n'Imana ku bwo igikorwa kidasanzwe, ntiyigeze arera amaboko, canke ngo aruhishwe n'ukwitangira igikorwa yakunda. Yandikiye Abakorinto ati «Gushitsa n'ubu twishwe n'inzara n'inyota, twambaye ubusa, dukubitwa ibipfunsi, tubura uburagamo, dukoresha amaboko yacu tukaruha: iyo badutuka turabahezagira, iyo baduhama turihangana.» 1 Ab'i Korinto 4:11,12.

Umwe mu bigisha b'abantu bahambaye, Paulo yakoze anezerewe ibikorwa vyo hasi cane nk'uko yakora n'ibihambaye. Igihe ku bwo Umwami vyaba ngombwa, yakora ata gahato ibikorwa
[185] vy'amaboko. Ariko kandi yama yiteguye gushira i ruhande ibikorwa vyiwe bisanzwe, kugira ngo ahangarane n'abansi b'ubutumwa bwiza, canke ngo acakire akaryo ko kuzanira Yesu imitima. Umwete wiwe n'ubwira mu bikorwa vy'amaboko, bitunga urutoke abarera amaboko n'abakunda kwiyorohereza. Paulo yatanze akarorero karwanya iciyumviro camaze gukwiragira mw'ishengero, ngo ubutumwa bwokorwa neza gusa n'abantu bakuweko umutwaro wo gukoresha amaboko. Yatanze akarorero k'ivyoshobora gukorwa n'abakorerabushake bitanze mu bibanza vyinshi aho abantu bataramenya ukuri kw'ubutumwa bwiza. Inyifato yiwe yafashije abakozi batobato kugira icifuzo co gukora ico bashoboye cose ngo bateze imbere igikorwa c'Imana kandi bironderera ibibatunga mu bikorwa vya misi yose. Akwila na Purisikila ntibasabwa kwihebera umwanya wose igikorwa c'ivugabutumwa, ariko abo bakozi bicisha bugufi bakoreshejwe n'Imana ngo bereke Apolo inzira y'ukuri

irushirije kuba nziza. Umwami akoresha abantu batandukanye mu gushigikira umugambi wiwe, kandi igihe abafise italanto zidasnazwe batoranywa ngo bakoreshe inkomezi zabo zose mu gikorwa co kwigisha no kwamamaza ubutumwa bwiza, abandi benshi, batigeze barambikwako ibiganza vy'abana b'abantu ngo bezwe, bahamagarirwa kugira uruhara rukomeye mu gukiza imitima.

Hari umurima munini wuguruye imbere y'abakozi bavuga ubutumwa bibeshaho. Benshi bashobora kuronka ubumenyi mu gikorwa c'ivugabutumwa kandi bakoresha igice c'umwanya wabo mu bikorwa vy'amaboko, maze muri ubwo buryo hakaboneka abakozi bakomeye bashobora gufasha mu bihande bikenye. Umusuku w'Imana yitanga, akora adahumeka mw'ijambo no mu nyifato, yikoreye umutwaro uremereye mu mutima wiwe. Ntaharura amasaha mu gikorwa ciwe. Ibihembo vyiwe ntaco bihindura mu gikorwa ciwe, canke ngo ahebe igikorwa kubera ibihe bigoye. Mw'ijuru niho havuye umuhamagaro wiwe, kandi mw'ijuru ni ho honyene yiteze ingororano igihe arangije igikorwa yashinzwe.

Ni umugambi w'Imana ko abakozi nk'abo bakurwako imyitwarariko idakenewe, kugira ngo bashobore kwubahiriza impanuro ikomeye Paulo yahaye Timoteyo, ati «Ivyo ubishireko umwete; uvyamemwo.» 1 Timoteyo 4:15. Nubwo basabwa kwiyubara ngo bagire inkomezi mu bwenge no mu mubiri, ntabwo ari umugambi w'Imana ko bagoberwa gufata umwanya munini bakora ibikorwa vyo kwikenura. Aba bakozi b'intungane, naho bemera gutanga no kwitanga ku bwo ubutumwa bwiza, ntibabura kugeragezwa. Igihe baburabujwe canke baremerewe n'imyitwarariko kubera ishengero ritabahaye ubufasha bw'amahera bakeneye, bamwe bacibwa inkokora n'umurwanizi. Iyo babonye ibikorwa vyabo bidashimwe uko bibereye, baca bihebura. Mu vy'ukuri barindiriye igihe c'urubanza ngo baronke impera yabo ishitse, kandi ibi birabanezera; ariko hagati y'aho imiryango yabo ikeneye ico ifungura n'ico yambara. Iyaba bokwumva ko bakuweko umutwaro v/umuhamagaro wTmana, bokwemeye gukoresha amaboko [186]
yabo. Ariko batahura ko umwanya wabo ari uw'Imana, batitayeho ubuhumyi bw'abategerezwa kubaha uburyo buhagije. Barengera ikigeragezo mu gukurikira inzira zobakura mu bukene, maze bakabandanya gukora kugira ngo bateze imbere igikorwa kuri bo gihambaye cane kuruta n'ubuzima. Ariko, kugira ngo babikore,

bategerezwa gukurikiza akarorero ka Paulo, maze mu gihe kimwe bagakora ibikorwa vy'amaboko kandi babandanya n'ugukora igikorwa cabo co kuvuga ubutumwa. Ibi ntibabikora ngo bateze imbere inyungu zabo, ahubwo ngo bateze imbere inyungu z'igikorwa c'Imana kw'isi.

Hari igihe bisa n'uko badashobokera umusuku w'Imana gukora igikorwa gikeneye gukorwa, ku bwo kubura uburyo bwo gukora igikorwa gikomeye, gishikamye. Bamwe batinya ko mu buryo bafise badashobora gukora ivyo bari bategerejwe gukora vyose. Ariko nibatera imbere ku kwizera, agakiza k'Imana kazokwigaragaza, kandi utwigoro twabo tuzororanirwa. Uwabariye abigishwa biwe ngo bagende mu bihande vyose vyo mw'isi, azoshigikira umukozi wese, ashaka kwamamaza ubutumwa bwiwe ku bwo kwumvira itegeko ryiwe. Mu kwubaka igikorwa ciwe, Uhoraho ntashira imisi yose imbere y'abasuku biwe ikintu cose bakeneye. Rimwe na rirnwe ashira ku munzane ukwizera kw'abantu biwe, mu kuzana ibihe bisaba kugendera mu kwizera. Kenshi abazana mu bibanza bigoye, akabasaba gutera intambwe aho ibirenge vyabo bisa n uko bikoze mu mazi ya Yorodani. Ni muri ivyo bihe, igihe amasengesho y'abasuku bayo aduga kuri yo bizeye vy'ukuri, Imana yugurura xnzira imbere yabo, maze ikabashikana ahashashe.

Iyo intumwa z'Imana zitahuye igikorwa zijejwe co gufasha ibihande bikenye vy'umurima w'Uhoraho, kandi bagakora bisunze umutima wa Mwene igikorwa badahumeka ngo bahindure imitima, abamarayika b'Imana bazobategurira inzira, maze uburyo bukenewe ngo bateze imbere igikorwa butangwe. Abo bamurikirwa bazotangana umutima ubikunze ngo bashigikire igikorwa gikorwa ku bwabo. Mu gutanga bazokwitaba umuhamagaro wose uzosaba ubufasha, kandi Mpwemu w'Imana azokora ku mitima yabo ngo bashigikire igikorwa c'Uhoraho, atari mu mirima y'i wabo gusa, ahubwo no mu turere twa kure. Gutyo abakozi bo mu bindi bibanza bazoronka inkomezi, kandi igikorwa c'Uhoraho kizotera imbere mu nzira yitoranirije.

## Ikigabane ca 34: Igikorwa Co Kwitanga

Mu buzima no mu nyigisho ziwe, Kristo yatanze akarorero kuzuye k'igikorwa kizira ukwikunda cakomotse ku Mana. Imana ntibayeho ku bwayo. Mu kurema isi, no mu gushigikira ibintu vyose, yama na ntaryo iriko irakorera abandi. «Atuma izuba ryiwe [187]
rirasira ababi n'abeza.» Matayo 5:45. Ubu buryo bw'akarorero Data yabushikirije Umwana wayo. Yesu yatanzwe ngo abere abantu bose indongozi, ku karorero kiwe kigisha ico bisobanura gukorera abandi. Ubuzima bwiwe bwose bwisunga ibwirizwa ryo gukorera abandi. Yakoreye bose, afasha bose. Yesu yagerageje kenshi gushinga iri tegeko mu bigishwa biwe. Igihe Yakobo na Yohana basaba ko boba abo imbere, yavuze ati, «Uwugomba kuba mukuru muri mwebwe, aze abe umukozi wanyu; kandi uwugomba kuba uwo imbere aze abe umuja wanyu: nk'uko Umwana w'umuntu atazanywe no gukorerwa, atari gukorera abandi, no gutanga ubugingo bwiwe kw'incungu ya benshi.» Matayo 20:26-28. Kuva aduga mw'ijuru, Kristo yaranguye igikorwa ciwe kw'isi akoresheje ivyariho vyatoranijwe, abo akoresha avugana n'abantu, maze akabafasha mu bukene bwabo. Umurongozi kizigenza w'ishengero ayobora igikorwa ciwe aciye mu bikoresho vy'abantu batoranijwe n'Imana ngo bakore nk'ivyariho vyiwe.

Igikorwa c'abo Imana yahamagaye gukora mu mvugo no mu nyigisho ngo bubake ishengero ryayo, kiraremereye cane. Mw'izina rya Kristo basabwa kwinginga abagabo n'abagore ngo biyuzuze n'Imana, kandi bashobore gushitsa inshingano yabo babanje kuronka ubwenge n'ubushobozi vyo mw'ijuru.

Abakozi ba kristo ni abarinzi mu vya Mpwemu b'abantu yabajeje. Igikorwa cabo cagereranijwe n'ico abarinzi. Mu bihe vya kera bahagarara ku mpome z'ibisagara, aho bashobora kubona n'akaryo ko gucungera ibibanza bikomeye bikeneye kurindwa, maze bakagabisha ko umwansi yegereje. Umutekano w'abari mu bisagara wari uhagaze ku bwizigirwa bw'abo barinzi. Ku bihe rimaka basabwa guhamagarana, ngo bamenye ko bose bari maso, kandi ko ata cago cashikiye umwe muri bo. Akamo k'inkuru nziza canke

ko kugabisha karahanahanwa muri bo, umwe wese asubiramwo ako kamo gushika gasamiranire mu gisagara cose. Uhoraho abwira umukozi w'ubutumwa bwiza wese ati «Mwana w'umuntu, nagushizeho kubera abo inzu ya Isirayeh inderetsi; nuko wumve ijambo riva mu kanwa kanje, ubashikirize imburi. Ninabarira umunyavyaha nti Ewe wa munyavyaha, ntuzobura gupfa; nawe ntugire ico uvuga co kuburira umunyavyaha ngo ave mu ngeso ziwe: uwo munyavyaha azopfira mu bigabitanyo vyiwe, ariko amaraso yiwe ni wewe nzoyaronderako. Yamara ni waburira umunyavyaha ivyo ingeso ziwe, ngo ahindukire azivemwo, nawe ntahidukire ngo azivemwo; azopfira jnu bigabitanyo vyiwe, ariko weho uzoba ukijije ubugingo bwawe.» Ezekiyeli 33:7-9.

Amajambo y'uwavugishwa n'Imana yemanga igikorwa gihambaye c'abatorewe kuba abarinzi b'ishengero ry'Imana, ababikijwe amabanga y'Imana. Basabwa guhagarara nk'inderetsi ku mpome
[188] za Siyoni, bagatera akamo umwansi yegereje. Abantu bari mu kaga ko kugwira mu kigeragezo, kandi bazorimbuka kiretse abakozi b'Imana babaye abizigirwa m bikorwa bashinzwe. Ni vyashika ku mvo iyo ari yo yose amaso mu vya Mpwemu agahuma ntibashobore kubona akaga, hanyuma kubera batagabishije abantu bagahona, Imana izobaharurako amaraso y'abahona. Ni amahirwe y'inderetsi zo ku mpome za Siyoni kuba cane hafi yTmana, kandi no gushobora gukorwako na Mpwemu wayo, ngo ashobore kubakoreramwo babwire abagabo n'abagore ko bari mu kaga, maze bakabayobora mu kibanza c'ubuhungiro. Bategerezwa kubaagabisha badaciye i ruhande inkurikizi ntabanduka y'ubugarariji, kandi bakarinda mu bwizigirwa inyungu z'ishengero. Ntibategerezwa gukubita akagohe n'akanya na gato. Igikorwa cabo gikeneye ko baakoresha ingabire y'ubuzima bwabo yose. Bategerezwa Kuduza amajwi yabo nk'inzamba, ntibavugane na rimwe ijwi rihungabana, rikekeranya. Ntibategerezwa gukora ku bwo ingero, ahubwo basabwa kubikora kuko ata kundi bogira kiretse kubikora, kuko batahura ko akaga kari ku mutwe wabo igihe batovuga ubutumwa bwiza. Batowe n'Imana, bashirwako ikidodo c'amaraso yo kwitanga, basabwa gukiza abagabo n'abagore ukurimbuka kwegereje.

Umuvugabutumwa akorana na Kristo azotahura ubweranda bw'igikorwa ciwe kandi azokora yongere agire ukwitanga gusabwa ngo agiteze imbere. Ntarondera ibimubereye canke ngo yiyoro-

hereze. Ariyibagira. Mu kurondera intama zazimiye, ntabona ko arushe, akanye, canke ashonje. Intumbero yiwe ni imwe gusa-gukiza abazimiye.

Uwukorera musi y'ihema ry'amaraso ya Imanuweli azosabwa gukora igikorwa gisaba ubutwari mu kwigora n'ukwihangana. Ariko umusoda w'umusaraba ahagarara imbere mu rugamba adasuha. Ubwo umwansi amuzigiriza, ni ko ahindukiriza amaso mw'iboma ngo aronke ubufasha, maze akibutsa Umwami amasezerano y'ijambo ry'Imana, akaronka inkomezi zo kurangura ivyo ajejwe kuri iyo saha. Atahura ko akeneye inkomezi ziva hejuru. Intsinzi atahukana ntizimutuma yishira hejuru, ahubwo bimutera kwisimga cane Nyene ubushobozi. Yishimikije ubwo bushobozi, ashobozwa gutanga ubutumwa bw'agakiza n'inkomezi ziwe zose ku buryo busamiranira mu mitima y'abandi.

Uwigisha ijambo ry'Imana ategerezwa we ubwiwe kwama buri mwanya yiyumva ko ari mu bumwe n'Imana mu gusenga no mu kwiga ijambo ryayo, kuko aha ariho hari isoko ry'mkomezi. Kugira imigenderanire n'Imana bizoha utwigoro tw'umukozi w'Imana ubushobozi burengeye ijunja ryiwe ryo gusigura. Ntakwiye kwemera kubura ubwo bubasha. Ategerezwa kwinginga Imana ashimitse ngo imukomeze ku bwo igikorwa n'amageragezwa, kandi imukoze ku munwa umuriro muzima. Ivyariho vya Kristo kenshi bifata cane minenerwe ibintu vy'ibihe bidashira. Iyaba abantu bagendana [189]
n'Imana, yobashize mu bwigobeko bwa ca Gitandara. Bahishijwe rero batyo, bashobora kubona Imana, nk'uko Mose yayibonye. Kubwo ubushobozi n'umuco itanga bashobora gutahura vyinshi kandi bagakora vyinshi kuruta ivyo ubwenge bwabo bubona ko bidashoboka.

Ubuhinga bwa Satani butsinda cane abantu bihebuye. Iyo gucika intege bisa n'uko biremereye umukozi w'Imana, nasuke imbere y'Imana ivyo akeneye. Mu gihe ijuru ryasa n'uko riguye kuri Paulo, niho yizigira cane Imana. Yari azi kuruta abantu benshi amarushwa ico ari co; ariko, umviriza akamo kiwe k'intsinzi: «Amarushwa yacu ahwahutse y'akanya ka none yiyongeranije cane kudushikiriza ubwiza buremereye bw'ibihe bidashira, Natwe ntituraba ku biboneka, ariko turaba ku bitaboneka.» 2 Ab'i Korinto 4:17,18. Amaso ya Paulo yama na ntaryo ahanze ibitaboneka n'ivy'ibihe bidashira. Amaze gutahura ko arwana n'ubushobozi

burengeye ubwo abantu, yishize mu burinzi bw'Imana, kandi aha niho hari inkomezi ziwe. Mu kwitegereza uwutaboneka niho turonkera inkomezi n'ubushobozi bw'umuntu, kandi ubushobozi bw'isi butegeka ubwenge n'ingeso bugatsindwa.

Umupasitori ategerezwa kwivanga n'abantu akorera, kugira ngo mu kubamenyera ashobore kumenya ingene yokwigisha inyigisho zikora ku ngorane zabo. Iyo umuvugabutumwa yasiguye, igikorwa ciwe niho kiba kigitangura. Hari igikorwa co gukora kimuraba ubwiwe. Ategerezwa kugendera abantu mu ngo zabo, avugana kandi asengana na bo n'umwete no kwicisha bugufi. Hari imiryango itazokwigera ishikirwa n'ukuri kw'ijambo ry'Imana kiretse ababikijwe ubuntu bwayo binjiye mu mazu yabo kandi bakabereka inzira iruta izindi zose. Ariko imitima y'abakora iki gikorwa itegerezwa gutera nk'uko umutima wa kristo utera. Vyinshi bitahurirwa muri iri tegeko «genda uje mu nzira z'iroro no mu mihora, ubagobere baze, kugira ngo inzu yanje yuzure.» Luka 14:23. Abavugabutumwa nibigishe ukuri mu miryango, biyegereza abo bakorera, maze ubwo bakorana n'Imana, izobambika ubushobozi bwa Mpwemu; kristo azobarongora mu gikorwa cabo, abahe amajambo yo kuvuga azodobera mu mitima y'abayumviriza. Ni amahirwe ya buri muvugabutumwa gushobora kuvuga nka Pulo ati, «Sinacishije i ruhande ndababwira ivyo Imana yagabiye vyose.» «Nta jambo ribereye nacishije i ruhande kubabwira canke kubigishiriza imbere y'abantu, no mu nzu ku yindi, . . . ukwihana mu nyongaz'Imana, n'ukwizera Umwami wacu Yesu Kristo.» Ivyakozwe n'Intumwa 20 :27, 20, 21.

Umukiza yagiye inzu ku yindi, akiza abarwaye, aremesha abagandaye, ahoza ababababaye, ahumuriza abihebuye. Yafata utwana duto mu maboko yiwe kandi akaduhezagira, maze akabwira amajambo y'ivyizigiro n'ihumure abavyeyi babo baremerewe. Mu bug-
[190] waneza n'urukundo rudahemuka yahangana n'ivyago vy'uburyo bwose, ndetse n'amarushwa yose y'abana b'abantu. Ntiyakora ku bwo inyungu ziwe, ahubwo yakorera abandi. Yari umusuku wa bose. Kuzanira ivyizigiro n'inkomezi abantu bose yahura nabo, ni vyo vyari indya n'ibinyobwa vyiwe. Kandi ubwo abagabo n'abagore bumviriza ukuri kuva mu kanwa kiwe, gutandukanye cane n'imigenzo n'inyigisho zigishwa n'abanyabwenge b'ivyanditswe, ivyizigiro vyadudubiza biva mu mitima yabo. Mu nyigisho ziwe zarimwo amajambo ahambaye bituma ashikira abantu

afise ubushobozi bubemeza. Abakozi b'Imana bategerezwa kwiga ubuhinga Kristo yakoresha, ngo bashobore kuvoma mu bubiko bw'ijambo ryiwe ibizomara ubukene mu vya Mpwemu abo bakorera. Aho honyene niho bazoshobora gushitsa ico basabwa gukora. Impwemu yari muri Kristo igihe yariko aratanga inyigisho yahabwa buri mwanya, itegerezwa kuba isoko y'ubumenyi bwabo n'ibanga ry'ubushobozi bwabo mu gukora igikorwa c'Umwami mw'isi.

Bamwe mu bakora igikorwa c'ivugabutumwa ntibashoboye kuronka intsinzi kubera batitanze batiziganya ku bwo igikorwa c'Uhoraho. Abavugabutumwa ntibotwarwa n'inyungu zitari izo igikorwa gihambaye co kurongora imitima ku Mukiza. Abarovyi Kristo yahamagaye, baciye buno nyene baheba insenga zabo, maze baramukurikira. Abavugabutumwa ntibashobora gukora igikorwa cemerwa n'Imana kandi bikoreye umutwaro w'ibikorwa vy'inyungu zabo. Ubu buryo bwo kwigabura mu kurondera inyungu buhuma amaso y'impwemu. Ubwenge n'umutima vyitwararika ivy'isi, maze igikorwa ca Kristo kigafata umwanya wa kabiri. Barondera gukora igikorwa c'Imana igihe bishoboka aho kurondera uburyo bwose bushoboka ngo bakore ivyo Imana ibasaba.

Inkomezi z'umuvugabutumwa zikenewe zose gukoreshwa ku bwo umuhamagaro wiwe w'agahebuza. Ubushobozi bwabo bukomeye ni ubwo Imana. Ntakwiye kwinjira mu vyo kurondera inyungu canke igikorwa ico ari co cose comubuza gukora igikorwa ciwe gihambaye. Paulo avuga ati «Nta musoda yikwegera mu vy'ubu bugingo, ngo aze ahimbare uwamwandikiye ubusoda.» 2 Timoteyo 2:4. Iyo ntumwa yashimangiye yerekana ko umuvugabutumwa akeneye kwihebera burundu igikorwa ca Shebuja. Umuvugabutumwa yihebeye Imana burundu yanka kwisuka mu bikorwa vyomubuza kwitangira ijana kw'ijana umuhamagaro wiwe wera. Ntarwanira icubahiro n'ubutunzi vy'isi; intumbero yiwe yo nyene nˆiyo kubwira abandi ivyo Umukiza, We yitanze ngo azanire abantu ubutunzi bw'ubugingo budashira. Icipfuzo ciwe nyamukuru si ico kwirundaniriza ubutunzi muri iyi si ahubwo ni ukwereka ba sindabibazwa n'abagabitanya ivyo ubugingo budashira. Ashobora gusabwa kwinjira mu bikorwa bimuzanira inyungu nyinshi kw'isi, ariko kuri ico kigeragezo yishura ati «Kandi umuntu vyomumarira iki kwunguka [191]
ivyo mw'isi vyose, ni yakwa ubugingo bwiwe kw'incungu? Mariko 8:36.

Satani yageragereshеje Kristo ibintu, bisa nk'ivyo, azi neza ko niyavyemera isi itazocungurwa. Mu buryo bwinshi bwihishije, azanira abakozi b'Imana b'uyu musi ico kigeragezo nyene, azi neza ko abakwegwa na co bazoteshwa kurangura ibanga bajejwe. Si ubugombe bw' Imana ko abavugabutumwa barondera kuba abatunzi. Kuri ivyo Paulo yandikiye Timoteyo ati «gukunda amahera ni imizi y'ibibi vyose: ayo bamwe bifuje, bakazimira, bagata ukwizera, bitobekeranisha imibabaro myinshi. Ariko weho, muntu w'Imana, wame uhunga ivyo, ariko ukurikire ukugororoka, n'ukwubaha Imana, n'ukwizera, n'urukundo, n'ukwihangana, n'ubugwaneza.» Mu karorero no mu nyigisho, icariho ca Kristo gitegerezwa «kwihaniza abatunzi bo mu vyo iki gihe, boye kwibona, canke kwishimira ubutunzi butari ubwo kwishimirwa, ariko bishimire Imana, iduha vyose bisesekaye, ngo tubinezerererwe; kandi bakore iciza, babe abanyabuntu bakunda gutanga, bibikire ubutunzi buzoba itanguriro ryiza mu gihe kizoza, kugira ngo bacakire ubugingo nyakuri.» 1 Timoteyo 6:10,11,17-19.

Ivyashikiye intumwa Paulo n'inyigisho ziwe zijanye n'ubweranda bw'igikorwa c'umuvugabutumwa, ni isoko y'ubufasha n'ubumenyi kuri abo binjiye mu gikorwa c'ubutumwa bwiza. Umutima wa Paulo wararurumba ku bwo urukundo afitiye abanyavyaha, kandi yashize inkomezi ziwe zose mu gikorwa co kuzana imitima. Ntihigeze kubaho umukozi yiyanka, w'inshigwarimenetse aruta Paulo. Imigisha yaronka yayiharura nk'amahirwe menshi aronse yo guhezagira abandi. Ntiyatakaza akaryo ko kuvuga Umukiza canke gufasha abari mu kababaro. Yava mu kibanza aja mu kindi yigisha ubutumwa bwiza bwa Kristo kandi ashinga amashengero. Aho hose yashobora kuronka abamwumviriza yagerageza kurwanya ikibi, n'ukugarukana ibirenge vy'abagabo n'abagore mu nzira y'ubugororotsi.

Paulo ntiyibagira amashengero yashinze. Amaze kurangiza urugendo rwo kuvuga ubutumwa, we na Barunaba basubira inyuma bakagendera amashengero bari barashinze, bagatoranya abantu bashobora kumenyereza ngo bafatanye nabo mu kwamamaza ubutumwa bwiza. Ibi biranga igikorwa ca Paulo birimwo icigwa gihambaye ku bavugabutumwa ba none. Iyo ntumwa yagize kimwe mu bikorwa vyiwe kwigisha abasore igikorwa co kuvuga ubutumwa. Yarajana na bo mu ngendo ziwe zo gutwara ubutumwa bwiza, gutyo rero bakaronka ubumenyi buzobafasha mu nyuma gukora ibikorwa bi-

hambaye. Igihe batandukana, yakomeza kwitwararika igikorwa ca bo, kandi amakete yandikiye Timoteyo na Tito ni icemezo c'ingene yifuza cane ukuroranirwa kwabo.

Uyu musi abakozi bamenyereye igikorwa, bakora ibikora inka iyo, mu kiringo co kwiremeka imitwaro yose bonyene, bigisha abakozi bakiri bato kandi bagashira imitwaro ku bitugu vyabo. Paulo ntiyigeze yibagira igikorwa kimwega nk'umukozi wa Kristo, canke ko ni hagira abantu bazohona kubera atabaye umwizigirwa Imana izobimubaza. Ku bwo ubutumwa bwiza yemanze ati, «Iryo nacikiye umukozi, nk'uko nahawe n'Imana ububwiriza bwo kugaburira mwebwe, kugira ngo nkwize ijambo ry'Imana rishitse, ni ryo banga ryari ryarahishijwe uhereye kera hose n'ibihe vyose, ariko noneho ryahishuriwe abera bayo, abo Imana yakunze kumenyesha itunga ry'ubwiza bw'iri banga, rivugwa mu banyamahanga, ni ryo kristo ari muri mwebwe, ivyizigiro vyo kuzoronka ubwiza. Natwe ni we twamamaza, duhanura umuntu wese twigisha umuntu wese ubwenge bwose, ngo dushikirize Imana umuntu wese ahinguwe muri Kristo Yesu: ico ni co kinduhisha, ndabirwanira nk'uko ubushobozi bwiwe buri, bunkoreramwo bishimitse.» Ab'i Kolosayi 1:25-29. [192]

Aya majambo ashira imbere y'umukozi wa kristo urugero rwo hejuru ategerezwa gushikako, ariko kandi uru rugero bose bashobora kurushikako, abemera gutegekwa n'Umwigisha Mukuru, bakiga buri musi mw'ishure rya Kristo. Ubushobozi bw'Imana ntibugira imbibe, kandi umukozi w'Imana abukeneye cane ashobora kwiyugarana akihererana n'Umwami, azomenya adakekeranya ko azoronka ibizobera abamwumviriza akanovera k'ubuzima gatanga ubuzima. Inzandiko za Paulo zerekana ko umukozi w'ubutumwa bwiza ategerezwa kuba akarorero k'ukuri yigisha, «ntabe igitsitaza mu kintu na kimwe, ngo ubutumwa bwiza ntibutukwe.» Yadusigiye ishusho y'igikorwa ciwe bwite mw'ikete yiwe yandikiye Abakristo b'i Korinto: «Ntitugira ico tuzana gitsitaza mu kintu na kimwe, mu marushwa, mu mibabaro, mu vyago, mu bimoko, mu mabohero, mu migumuko, mu kwirirwa ubusa, mu kugira umutima utanduye, mu kugira ubwenge, mu kutarambirwa, mu kuba inda nziza, muri Mpwemu Yera, mu rukundo rutagira uruheyiheyi, mw'ijambo ry'ukuri, mu bushobozi bw'Imana, dufise ibirwanishwa vy'ukugororoka vyo mu kuryo n'ivyo mu kubamfu, mu cubahiro no mu gakengerwe, mu mugayo no mw'ishimwe; twiyumvirwa nk'abanyabinyoma ariko

turi abanyakuri; twiyumvirwa nk'abatamenyekana, ariko turi rurangiranwa; tuboneka nk'abagira bapfe, ariko raba, turi bazima, tuboneka nk'abahamwa, ariko ntitwicwa; tuboneka nk'abababara, ariko tunezerwa imisi yose; tuboneka nk'aboro, ariko dutungisha benshi.» 2 Ab'i Korinto 6: 3, 4-10. Yandikiye Tito ati: «N'imisore n'uko ubahanure ntibahugumbe. Nawe ubwawe wiyerekane muri vyose nk'icitegererezo c'ibikorwa vyiza: ugire ukwigisha kudatosekaye, ube inyankamugayo, ugire n' ijambo rizima rito-
[193] gawa, kugira ngo umuntu ari mu ruhande rw'abansi amaramare, abuze ikibi yokuvugako.» Tito 2:6-8.

Nta kintu kirusha agaciro mu maso y'Imana abakozi bayo, baja mu turere tugayitse two mw'isi kubiba imbuto z'ukuri, biteze umwimbu. Nta wundi kiretse Kristo ashobora gutahura urugero rw'imyitwarariko y'abasuku bayo barondera abazimiye. Abaha Mpwemu wiwe, kandi kubwo utwigoro twabo, imitima irongorwa kuva mu caha ikaza mu bugororotsi. Imana ihamagara abantu bemera guheba amatongo yabo, ngo bambuke baje kuyivugira, kandi uyu muhamagaro uzokwitabwa. Muri kahise hari abantu basunitswe n'urukundo rwa Kristo n'ubukene bw'abazimiye baheba ivyiza vy'imiryango n'abagenzi babo, mbere baheba umugore n'abana, baja mu bihugu vyo mu mahanga, hagati y'abasenga ibigirwamana n'abantu b'inyeshamba, bamamaza ubutumwa bw'imbabazi. Bamwe mu twigoro twabo batakaje ubuzima, ariko abandi babandanya igikorwa. Gutyo, intambwe ku yindi, igikorwa ca Kristo carateye imbere, kandi imbuto zabibwe mu kababaro zazanye umwimbu mwinshi. Kumenya Imana kwariyongeye kandi ibendera ry'umusaraba ryashinzwe mu bihugu vy'abapagani.

Ku bwo guhinduka kw'umunyavyaha umwe, umuvugabutumwa ategerezwa gukoresha uburyo bwiwe uko ashoboye. Umuntu Imana yaremye kandi Kristo akamucungura, afise agaciro kanini cane ku bwo ubushobozi buri imbere yiwe ashobora kuronka igihe akomejwe n'ijambo ry'Imana, n'ukudapfa ashobora kuronka biciye mu kwizigira kwerekanwa mu butumwa bwiza. Kandi namba Kristo yahevye za ntama mirongo icenda n'icenda ngo arondere imwe yazimiye, hari ico twokwireguza dukoze ibiri musi y'ivyo? Si urwangara kudakora nk'uko Kristo yakoze, kutitanga nk'uko yitanze, si ukugurisha ivyera twabikijwe, si igitutsi ku Mana? Umutima w'umukozi w'Imana wuzura igishika co kurondera gukiza

imitima. Umwanya n'inkomezi biratangwa, utwigoro turuhije ntituzigamwa; kuko abandi bategerezwa kwumva ukuri kwazaniye umutima wiwe umunezero n'amahoro, n'akanyamuneza. Umutima wa Kristo uri muri we. Yitwararika imitima nk'uwuzoyibazwa. Amaso yiwe ahanze umusaraba w'i kaluvari, yitegereza Umukiza yabambwe, yisunga ubuntu bwiwe, yizera ko azobana na we kw'iherezo, agakorera Imana amufise nk'inkinzo yiwe, inkomezi ziwe n'ubushobozi bwiwe. Arondera kuzanira Yesu imitima, ahamagara yinginga kandi yizeye urukundo rw'Imana, kandi mw'ijuru aharurwa muri ba bandi bitwa «abahamagawe, kandi batoranijwe, kandi bayobotse.» Ivyahishuriwe Yohana 17:14.

[194] ## Ikigabane ca 35: Agakiza Ku Bayuda

*Iki kigabane Gishimikiye kw'lkete Ryandikiwe Abarotna*

Amaze igihe yinanata ngo agende ariko bidakunda, Paulo arateba ashika i Korinto, aho yakoreye ibikorwa biruhije muri kahise kandi bikamuzanira imyitwarariko -myinshi mu gihe runaka. Yasanze abizera benshi ba mbere bakimufitiye igishika nk'uwabaye uwambere kubashikiriza umuco w'ubutumwa bwiza. Ubwo yaramutsa aba bigishwa kandi akabona ivyemezo vy'ubuyoboke n'umwete vyabo yaranezerewe kubona igikorwa ciwe muri Korinto kitabaye impfagusa. Abizera b'i Korinto, kare bihuta kwibagira umuhamagaro wabo uhambaye muri kristo, bari baratojwe inkomezi ya kamere ya Kristo. Amajambo n'inyifato vyabo vyagaragaza ubushobozi buhindura bw'Imana, kandi noneho bari n'inkomezi zihambaye zo gukora iciza muri ico gisagara c'ubupagani n'ukwizera ibintazi. Hagati y'abo bakunzi kandi bakaba n'abahindutse abizigirwa, umutima w'iyo ntumwa urushe kandi ubuze amahoro waronse uburuhukiro.

Mu misi yamaze i Korinto, Paulo yaronse akaryo ko kwiyumvira ahantu hashasha kandi hagutse azokorera. Urugendo rwiwe rwokuja i Roma rwari mu vyiyumviro vyiwe kuruta ibindi vyose. Kubona Ubukristo bushinga imizi hagati y'ico gisagara kinini rurangiranwa mw'isi yose yari izwi muri ico gihe, cari kimwe mu vyifuzo vyiwe n'imigambi yiwe bimuraje ishinga. Ishengero ryari rimaze gushingwa i Roma, kandi iyo ntumwa yifuza gufashanya n'abizera baho mu gikorwa yari yimirije gukora mu Butaliyano no mu bindi bihugu. Kugira yitegurire ibikorwwa vyiwe hagati y'abo bavandimwe, benshi mbere bakaba bakiri basha kuri we, yabarungikiye ikete rimenyesha urugendo rwiwe rw' i Roma, kandi n' ivyizigiro vyiwe vyo gushinga ibendera ry'umusaraba muri Espanye.

Mw'ikete ryiwe ku Baroma, Paulo yashinze inyigisho ngenderwako z'ubutumwa bwiza. Yavuze aho ahagaze ku bibazo vyari biraje ishinga amashengero y'Abayuda n'abanyamahanga, kandi yerekana

ko ivyizigiro n'amasezerano vyari vyabanje guhabwa Abayuda ku buryo bw'umwihariko, noneho bihawe n'abanyamahanga. Iyo ntumwa yatanze inyigisho yo gutsindanishirizwa ku bwo kwizera Kristo n'ubwira n'ubushobozi bwinshi. Yizigira ko ayandi mashengeo nayo nyene yashobora gufashwa n'inyigisho yarungikiye Abakristo i Roma; ariko yashobora gute kubona aho ubushobozi bw'amajambo yiwe buzoshika! Mu myaka yose, ukuri kwerekeye gutsindanishirizwa ku bwo kwizera kwahagaze nk'urumuri rw' ubushobozi ruyobora mu nzira y'ubugingo abanyavyaha bihanye, uru rumuri ni rwo rwasanzanje umwiza wari watwikiriye ubwenge bwa Luther, maze rumuhishurira ubushobozi bw'amaraso ya Kristo yoza icaha. Urwo rumuri nyene rwayoboye kw'Isoko [195]
y'ukuri y'imbabazi n'amahoro ibihumbi vy'abantu baremerewe n'ivyaha. Ku bwo iri kete ryandikiwe Abaroma, Umukristo wese akwiye gushima Imana.

Muri iri kete Paulo yavuze ikiri ku mutima cose ku mutwaro yari yikoreye ku bwo Abayuda. Uhereye igihe yahinduka, yagerageje gufasha bene Data b'Abayuda gutahura neza ubutumwa bw'Inkuru Nziza. Yavuze ati, «Icifuzo c'umutima wanje n'ico nsaba Imana ku bwa Isirayeli ni uko bokizwa.»Nticari icifuzo gisanzwe iyo ntumwa yari ifise. Igihe cose yama asaba Imana ko yokorera Abisirayeh bari baranse kwemera Yesu, Umunyanazareti nka Mesiya yasezeranywe. Yemangiye abizera b'i Roma ati, «Ndavuga ukuri muri kristo, simbesha, ijwi ryo mu mutima wanje ribwiririkanya nanje muri Mpwemu Yera, yuko mfise intuntu nyinshi n'umubabaro udahengeshanya mu mutima. Iyaba vyashoboka, noshimye kuvumwa no kuba igicibwa kuri Kristo ku bwa bene wacu, abo tuvukana ku mubiri: ni bo Isirayeli, ivyabo n'ugucika abana b'Imana, n'ubwiza, n'amasezerano, no guhabwa ivyagezwe, no gusenga Imana, n'ivyasezeranywe; bafise ba sogokuruza ba bandi, kandi ku mubiri Kristo yamanutse kuri bo, ni we ari hejuru ya vyose, ni we Mana ikwiye gushimwa ibihe bidashira.»

Abayuda bari ubwoko bw'Imana yatoranije, abo yari ifise umugambi wo guhezagira amahanga yose iciye muri bo. Muri bo Imana yari yarahagurukije abavugishwa nayo benshi. Aba bari baratanze imburi y'ukuza kw'Umucunguzi azokwankwa kandi akicwa n'abari ku ba aba mbere kumumenya nk'Uwasezeranywe. Uwavugishwa n'Imana Yesaya, aravye mu binjana bizoza kandi ak-

abona ingene bazohakana abavugishwa umwe ku wundi kandi amaherezo bakazohakana n'Umwana w'Imana, yahumekewe kwandika ibijanye n'ingene Umucunguzi azokwakirwa n'abatigeze baharurwa mu bana b'Isirayeli. Paulo yerekeje amaso kuri iyo mburi avuga ati: «Yesaya ashira amanga cane aravuga, ati Nabonywe n'abatandondeye, Neretswe abatambaririkije. Ariko ku Bisirayeli aravuga ati: Niriirwa ntegeye amaboko ubwoko butumva butongana.»

N'ubwo Isirayeh yihakanye Umwana wayo, Imana ntiyabahevye. Umve ingene Paulo abandanya iciyumviro ciwe: «Nuko ndabaza: Mbega Imana yaciye abantu bayo? Eka na mba! Kuko nanje ndi Umwisirayeh, wo mu ruvyaro rwa Aburahamu, wo mu muryango wa Benyamini. Imana ntiyataye abantu bayo yamenye kera. Canke ntimuzi uko Ivyanditswe bivuga kuri Eliya? Ko yareze Abisirayeli ku Mana, ati Mwami bishe abavugishwa nawe, basambuye ibicaniro vyawe; nanje nsigaye jenyene, kandi barangenza ngo banyice. Ariko Imana yamwishuye ngw'iki? Iti Nisigarije abantu ibihumbi indwi batapfukamiye Bayali. Nuko, ni ko biri no muri iki gihe, hari amasigarira nk'uko yatoranijwe n'ubuntu bw'Imana.» Isirayeli yari yatsi-
[196] taye kandi iratemba, ariko ibi ntivyatumye bidashoboka ko bavyuka. Kuri iki kibazo, «Mbega batsitariye kugwa burundu?» Iyo ntumwa yishura iti: «Eka na mba! Yamara ukugwa kwabo kwazaniye abanyamahanga agakiza, ngo bitere Abisirayeli ishari. Ariko ko ukugwa kwabo ari ubutunzi bw'abari mw'isi, n'ukugabanuka ari ubutunzi bw'abanyamahanga, ukugwira kwabo ntikuzorushiriza cane? Ariko ndababarira mwebwe, abanyamahanga. Ndahimisha igikorwa canje, kuko ndi intumwa ku banyamahanga, kugira ngo kumbure ntere ishari abo i wacu, nkize bamwe muri bo. Ko gutabwa kwabo kwazaniye abari mw'isi kwuzura n'Imana, ukugarukanwa kwabo kuzoba gute? Mbega ntikuzoba ubugingo buzutse mu bapfuye?

Wari umugambi w'Imana ko ubuntu bwayo buhishurwa mu banyamahanga co kimwe no mu b'Isirayeli. Ibi vyari vyaravuzwe mu majaiinbo y'abavugishwa n'Imana mw'Isezerano rya Kera. Iyi ntumwa ikoresha zimwe muri izo mburi mu guserura iciyumviro cayo. Irabaza iti «Mbega icabumbwe cobaza uwakibumvye, kiti ni iki catumye umbumba utya? Canke umubumvyi ntagera ibumba mu mugoma umwe kubumbamwo urwavya rumwe rwo gukoresha ivyo icubahiro, n'urundi rwo gukoresha ibiteye isoni? Mbega hari

ico biriko, naho Imana yagomvye kwerekana uburake bwayo, no kumenyesha ubushobozi bwayo, namba yihanganiye imbabazi nyinshi inzavya z'ukuraka, ziteguriwe guhona: kugira ngo yerekanire ubutunzi bw'ubwiza bwayo ku nzavya z'ikigongwe, izo yiteguriye guha ubwiza kera, kuri twebwe, abo yahamagaye, si mu Bayuda bonyene ariko no mu banyamahanga? Nk'uko yavugiye mu kanwa ka Hoseya, iti Abatari abantu banje nzobita abantu banje, kandi uwutari inkundwakazi nzomwita inkundwakazi. Kandi aho hantu babwiriwe, ngo Ntimuri abantu banje, niho bazokwitirirwa abana b'imana nzima.» Raba Hoseya 1:10.

Hatabaye kuraba ugutsindwa kwa Isirayeli nk'ihanga, harasigaye muri bo amasigarira yubaha Imana azokizwa. Igihe Umukiza yaza hariho abagabo n'abagore b'intungane bari bakiranye umunezero ubutumwa bwa Yohana Umubatizi, kandi bari bayobowe kwiga busha ivy'abavugishwa n'Imana bavuze kuri Mesiya. Igihe ishengero Rukristo rya kera ryashingwa, ryari rigizwe n'abo Bayuda bemeye Yesu Umunyanazareti nka wa wundi bari bararindiriye. Ni ayo masigarira Paulo yiyumvira igihe yandika ati, «Kandi ifu y'umushuzo ari iyera, n'irobe niko rimeze; kandi ko igishitsi ari icera, n'amashami ni ko ameze.»Paulo agereranya amasigarira y'Isirayeli n'igiti ca elayo bwite, cakuweko amashami amwe amwe. Agereranya abanyamahanga n'ikija ca elayo catewe nk'ingurukizi hagati mu mashami. Yandika ati «Namba amashami amwe yarahanyuwe, nawe uri ikija ca elayo bwite, ntiwihayagize kuri ayo mashami. Namba uyihayagizako si igishitsi kimeze kuri wewe, ariko ni wewe umeze ku gishitsi. Wovuga rero uti Amashami yahanyuwe kugira nterweko. Ni ko: ukutizera ni ko kwayahanyuje, [197]
nawe ukwizera ni ko kwaguhagaritse. Ntiwibone, ariko wiyubare. Kuko Imana, ko itagiriye ikigongwe amashami bwite, nawe ntuzokigiririrwa. Raba rero ukugira neza kw'Imana, n'ubuhambazi bwayo: ku baguye si ubuhambazi, ariko kuri wewe ni ukugira neza kw'Imana, ni waguma muri uko kugira neza kwayo: kuko n'utagira utyo, nawe uzohanyurwa.»

Kubera ukutizera n'uguhakana umugambi w'Ijuru kuri bo, Isirayeli nk'ihanga yatakaje ubumwe bwayo n'Imana. Ariko amashami yari yarahanyuwe ku gishitsi Imana yashoboye kuyunga n'igishitsi c'ukuri ca Isirayeli- amasigarira yagumye ayobokeye Imana ya ba sogokuruza. Iyo ntumwa kandi ivuga kuri ayo mashami yahanyuwe

iti «Nibataguma mu kutizera, bazosubizwako nk'ingurukizi: Imana ishobora kubasubizako.» Yandikira abanyamahanga ati «Kuko, ko wahanyuwe ku giti cameze ari ikija ca elayo, ugaterwa nk'ingurukizi muri elayo nziza, mudasangiye ubwoko, ba bandi babusangiye ntibazorushiriza cane guterwa muri elayo yabo? Bene Data, singomba ko mutamenya iri banga, mwoye kwiyita abanyabwenge, ni iryo uko habaye gukomantaza imitima y'Abisirayeli, ariko si bose, gushitsa aho igitigiri c'abanyamahanga kizokwinjira mw'ishengero. «Ni vyaba bityo, Abisirayeli bose bazokizwa, nk'uko handitswe ngo I Siyoni hazova Umurokozi, azokura muri Yakobo ukutubaha Imana. Kandi ni ryo sezerano nsezeranye nabo, aho nzobakurako ivyaha. Ku vyo ubutumwa bwiza, ni abansi ku bwanyu: ariko ku vyo ugutoranya kw'Imana, ni abakundwa ku bwa basekuruza. Kuko ingabire z'Imana no guhamagara kwayo itavyicuza. Nk'uko kera mwagarariza Imana, ariko none umugararizo wabo wazaniye mwebwe kugiririrwa imbabazi: niko na bo none bagararije, kugira ngo imbabazi mwagiriwe zibazanire na bo kuzigiririrwa. Kuko Imana yugaraniye abantu bose mu mugararizo, kugira ngo ibagirire imbabazi bose. «Yo, uburebure bw'amaj'epfo bw'ubutunzi bw'ubwenge no kumenya vy'Imana! Imigabo yayo ntishoboka kubariritswa, n'inzira zayo ntizigira akehe! Ninde yamenye umutima w'Uhoraho? Canke ni nde yabaye umujanama wiwe? Canke ninde yabanje kumuha kandi akazokwishurwa? Kuko vyose biva muri We, kandi bizanwa na We: icubahiro kibe iciwe ibihe bidashira.»

Paulo rero yerekana ko Imana ishoboye cane guhindura imitima y'Abayuda cokimwe n'iyo abanyamahanga, n'uguha uwizera kristo imihezagiro yasezeraniwe Isirayeli.' Asubiramwo amajambo Yesaya yavuze ku bantu b'Imana. «Igitigiri c'Abisirayeli naho coba nk'umusenyi wo ku kiyaga, amasigarira ni yo azokira: kuko Uhoraho azoshitsa ijambo ryiwe mw'isi, ariringanize kandi arihimbure. Kandi nk'uko Yesaya yabivuze kera, ati Iyaba Uhoraho Nyene ingabo atadusigarije uruvyaro, tuba twarabaye nka Sodoma na Gomora.»

[198] Igihe Yerusalemu yasenyurwa n'urusengero rugasigara ari umusaka, ibihumbi vyinshi vy'Abayuda bagurishijwe mu mahanga bakora nk'abaja mu bihugu vy'abapagani. Nk'ibitandara ku nkengera y'ubugaragwa basanzaye mu mahanga. Mu myaka igihumbi n'amajana atanu Abayuda bangajwe bava mu gihugu

baja mu kindi mw'isi yose, kandi nta na hamwe bigeze baharurwa nk'ihanga. Baradodoberezwa, bakankwa, bagahigwa kuva mu kinjana ukaja mu kindi ubuzima bwabo bwabaye ubwo imibabaro.Hatitaweho amajambo ateye ubwoba yavuzwe ku bizoshikira Abayuda nk'ihanga igihe bihakana Yesu Umunyanazareti, mu bihe vyose hamye haboneka abantu benshi b'intungane, Abayuda b'abagabo n'abagore bubaha Imana bababarijwe mu gacerere. Imana yararemesheje imitima yabo yari mu marushwa kandi irabana impuhwe ubuzima bugoye cane barimwo. Yumvise amasengesho y'agahinda y'abantu bayirondeye n'umutima wabo wose, ngo batahure neza ijambo ryayo. Bamwe batahuye ko uwo Munyanazareti yiyoroheje basekuruza bihakanye bakamubamba yari Mesiya nyakuri w'Isirayeli. Ubwo ubwenge bwabo bwatahuye ubusobanuro bw'ivyavuzwe n'abavugishwa n'Imana vyari vyarahishijwe n'imigenzo n'ubusobanuro butari bwo, imitima yabo yuzuye ugushima Imana ku ngabire itagira akagero yahaye umuntu wese ahisemwo kwakira Kristo nk'Umukiza wiwe bwite.

Aba ni bo Yesaya avuga mu majambo yavugishijwe, ati «Amasigarira azokizwa.» Uhereye mu gihe ca Paulo gushitsa n'ubu, Imana ikoresheje Mpwemu Yera wayo, yama ihamagara Abayuda co kimwe n'abanyamahanga. Paulo avuga ati «Imana ntirobanura abantu.» Iyo ntumwa yiyumva ko «ifitiye umwenda Abagiriki, bo n'abanyamahanga badebagura,» ariko ntiyigeze yibagira amahirwe Abayuda barusha abandi, «Cane cane, kuko babikijwe ivyavuzwe n'Imana.» Avuga ati «Ubutumwa bwiza ni ubushobozi bw'Imana, buzanira uwizera wese agakiza, uhereye ku Muyuda ukageza ku Mugiriki. Kuko muri bwo ari ho ukugororoka kuva ku Mana guhishurirwa, gusheshwa n'ukwizera kukagwiza ukwizera, nk'uko vyanditswe ngo Umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera.» N'ubu butumwa bwiza bwa Kristo, bufitiye akamaro Abayuda co kimwe n'abanyamahanga. Paulo mw'ikete yandikiye Abaroma avuga ko adaterwa n'isoni nabwo. Igihe ubu butumwa bwiza buzoshikirizwa Abayuda bwuzuye neza, benshi bazokwakira Kristo nka Mesiya. Mu bavugabutumwa b'Abakristo ni bake biyumva ko bohamagarirwa gukorera Abayuda; ariko kuri abo bashizwe i ruhande, co kimwe n'abandi bose, ubutumwa bw'imbabazi n'ivyizigiro butegerezwa kubashikira.

Mu gihe co kuvuga ubutumwa bwiza ubwa nyuma, aho igikorwa kidasanzwe kizotegerezwa gukorwa ku bwo abantu nk'abo bakumiriwe, Imana yiteze ko intumwa zayo zitwararika ku buryo
[199] bw'umwihariko Abayuda baboneka mu bice vyose vy'isi. Ubwo ivyanditswe vy'Isezerano rya Kera bivanze n'ivy'Isezerano mu gusobanura umugambi w'ibihe vyose w'Imana, ibi bizobera Abayuda benshi nk'umutwenzi w'irema risha, izuba ry'umutima. Ubwo babona Kristo wo mu butumwa bwiza yerekanwa mu mpapuro z'Ivyanditswe vy'Isezerano rya Kera, kandi bagatahura neza ingene Isezerano Risha risobanura irya Kera, ubwenge bwabo bwari bwarazimiye buzokwikangura, maze batahure Kristo nk'Umukiza w'isi. Benshi, ku bwo kwizera, bazokwakira Kristo nk'Umucunguzi wabo. Kuri bo hazoshika ya majambo ngo «Ariko abamwakiriye bose yabahaye ububasha bwo gucika abana b'Imana, ni bo bizeye izina ryiwe,» Yohana 1:12. Mu Bayuda hari bamwe, nka Sauli w'i Taruso, bakomeye mu Vyanditswe Vyera, kandi abo bazokwamamaza n'ubushobozi butangaje ivyagezwe vy'Imana bidahinduka. Imana y'Isirayeli izotuma ibi biba mu gihe cacu. Ukuboko kwayo si kugufi ngo kunanirwe gukiza. Ubwo abasuku bayo bakorera mu kwizera abo bantu barenganijwe kuva kera kandi bagakengerwa, agakiza kayo kazohishurwa. «None rero Uhoraho, ariwe yacunguye Aburaha mu, uku niko avuze ku vyo inzu ya Yakobo, ati Yakobo ntazokwongera guteterwa, kandi mu maso hiwe ntihazosubira kubwerabwera. Ariko ubwiwe n'abana biwe ni babona ivyo amaboko yanje akorera hagati muri bo, bazokwemera izina ryanje ko ryera; mbere bazokwemera Uwera wa Yakobo ko nera, bahindire agashitsi Jewe Imana y'Abisirayeli. Kandi n'abazimira mu mitima bazoca ubwenge, n'abidodomba bazokwemera kwigishwa.» Yesaya 29:22-24.

## Ikigabane ca 36: Ubuhakanyi I Galatiya

*Iki kigabane Gishimikiye kw'Ikete Ryandikikwe abo i Galatiya*

Igihe yatebera i Korinto, Paulo yatahuye ingorane zihambaye zari mu mashengero amwe amwe yari yaramaze gushinga. Kubera abigishwa b'ibinyoma bari biyadukije mu bizera i Yerusalemu, kwigaba ibice, inyigisho zigoramye, guharanira ibiryohera umubiri, vyariko birakwiragira mu bizera b'i Galatiya. Abo bigisha b'ibinyoma bavanga imigenzo ya Kiyuda n'ukuri kw'ubutumwa bwiza. Birengagije ingingo zafashwe n'inama ya bose yabaye i Yerusalemu, bategeka abanyamahanga gukurikiza amategeko y'ivyagezwe vy'imihango. Ibintu vyari bikomeye. Ibibi vyari vyinjijwe vyagira bisenyure amashengero y'i Galatiya mu buryo bwihuta cane. Paulo yavunitse umutima, maze ababazwa n'ubwo buhakanyi bugaragara bw'abo yari yarigishije neza ingingo ngenderwako z'ubutumwa bwiza. Buno nyene yaciye yandikira abo bizera bageramiwe, abereka inyigisho z'ibinyoma bari bakiriye kandi yihaniza ashimitse abariko barata ukwizera. Amaze kuramutsa Abagalatiya muri aya majambo, «Ubuntu bube muri mwebwe n'amahoro [200] biva ku Mana Data wa twese, no ku Mwami wacu Yesu Kristo,» yababwiye aya majambo akomeye yo kubihaniza: «Ndatangara yuko muriko murareka vuba mutyo iyabahamagaye ku bwo ubuntu bwa Kristo, mukemera ubutumwa bunyuranye n'ubwo, kandi ata bundi buriho; ariko hari abantu babahagarika imitima, bakagomba guhindura ukundi ubutumwa bwa Kristo. Ariko naho yoba twebwe canke umumarayika avuye mw'ijuru, ababarira ubutumwa bunyuranye n'ubwo twababariye, arakavumwa.» Inyigisho za Paulo zari zihuye n'Ivyanditsw Vyera, kandi Mpwemu Yera yari yashingiye intahe ibikorwa vyiwe; yagabishije rero abo bene Data kutumviriza ikintu na kimwe giteye kubiri n'ivyo yari yarabigishije.

Iyo ntumwa yasavye abizera b'i Galatiya kwihweza neza ubuzima bwabo bwa mbere, bw'igihe bakira Kristo. Yateye akamo ati, «Bagalatiya b'ibijuju, ninde yabaroze, kandi ari mwebwe mw-

eretswe Yesu Kristo abambwe, mu maso yanyu? Iki conyene ni co ngomba ko mumbwira: mbega Mpwemu mwamuronkeshejwe n'ibikorwa vy'ivyagezwe, canke n'ukwumva gufatanije n'ukwizera? Mbega mwakabaye muri ibijuju mutyo? Mwatanguye mu vya Mpwemu, mbega none musozereye mu vyo umubiri? Mbega ayo yose mwayaboneye ubusa? Namba yari ay'ubusa koko! Iyibaha Mpwemu, igakorera ibitangaza muri mwebwe, mbega ibikoreshwa n'uko mukora ibikorwa vy'ivyagezwe, canke n'uko mwumvise mukizera? Paulo rero yashengeje abizera b'i Galatiya imbere ya Sentare y'umutima-nama wabo, kandi yashaka kubahagarika mu ngendo yabo. Yishimikije ubushobozi bw'Imana bukiza, kandi yanka kwemera izo nyigisho z'abo bigisha b'abahakanyi, iyo ntumwa igerageza gufasha abo bizera gutahura ko bari barahenzwe bikabije, ariko ko ni bagaruka ku kwizera ubutumwa bwiza nka mbere bashobora gutsinda umugambi wa Satani. Yahagaze ashikamye ku ruhande rw'ukuri n'ubugororotsi, kandi ukwizera kwiwe gukomeye n'ukwizigira ubutumwa yari afise, vyafashije kugaruka ku Mukiza abantu benshi bari barataye ukwizera.

Ehe ingene uburyo Paulo yandikiye amashengero y'i Korinto butandukanye n'uburyo yandikiye Ab'i Galatiya! Aba mbere yabihanije mu bwenge n'ubugwaneza, aba nyuma abihaniza atarya umunwa. Abakorinto bari baneshejwe n'ikigeragezo. Bari bahenzwe n'amayeri y'abigisha, bari babazaniye ibinyoma vyiyorobekesheje ukuri, barazazanirwa, barazimira. Kubigisha gutandukanya ukuri n ikinyoma vyasaba ubwitonzi n'ukwihangana. Gukoresha amajambo akaze canke y'ihutihuti vyari gutuma Paulo atakaza ubushobozi yari afise ku bantu benshi yifuza gufasha. Mu mashengero y'i Galatiya, ikinyoma kigaragara, kitiyorobetse, cariko kirasubirira ubutumwa bwiza. Kristo, inkingi nyakuri y'ukwizera, yasa n'uko bamutaye bamusubiriza imigenzo yataye igihe y'Abayuda. Iyo ntumwa yabonye ko kugira abizera b'i
[201] Galatiya bakingirwe ivyo bintu biteye ubwoba vyari bibageramiye, ingingo ruhasha zategerezwa gufatwa, bakagabishwa bimwe bikomeye.

Icigwa gikomeye umukozi wa Kristo ategerezwa kwiga, ni uko yokora yisunga uko abantu ashaka gufasha bameze. Ubugwaneza, kwihangana, gufata ingingo, n'ugukara birakenewe co kimwe; ariko ibi bisaba gukorwa mu bushishozi bubereye. Gukorana

ubwenge n'imigwi y'abantu batandukanye mu vyiyumviro, mu buzima no mu bihe bidasa, ni igikorwa gikeneye ubwenge n'ugutahura bimurikiwe kandi vyejejwe na Mpwemu w'Imana. Mw'ikete ku bizera b'i Galatiya Paulo yasubiyemwo mu ncamake ibintu bihambaye vyamushikiye bijanye n'uguhinduka kwiwe, n'ivyamubayeko mu misi ya mbere y'Ubukristo bwiwe. Muri ubwo buryo yashaka kubereka ko mu kwiyerekana kudasanzwe kw'ubushobozi bw'Imana yashoboye kubona no gutahura ukuri gukomeye kww'ubutumwa bwiza. Mu nyigisho yahawe n'Imana ubwayo, niho Paulo yasunitswe kubigisha no guhanura Abagalatiya ku mugaragaro kandi mu buryo butomeye. Yanditse adatinya canke adakekeranya, ahubwo azi neza ico akora kandi abitahura. Yarerekanye neza itandukaniro riri hagati yo kwigishwa n'umuntu no kwigishwa na Kristo ubwiwe.

Iyo ntumwa yasavye Abagalatiya guheba izo ndongozi z'ibinyoma zari zabazimije, no gusubira ku kwizera kwari kwaranzwe n'ivyemezo ntahinyuzwa vy'ikidodo c'Imana. Abo bantu bari bagerageje kubakura ku kwizera ubutumwa bwiza bari indyadya, zitejejwe mu mitima kandi zononekaye. Idini ryabo ryari rigizwe n'imihango biyumvira ko bayikoze bazokwemerwa n'Imana. Ntibipfuza ubutumwa bwiza busaba kwumvira rya jambo, «Iyo umuntu atavyawe ubwa kabiri, ntashobora kubona ubwami bw'Imana.» Yohana 3:3. Babona ko idini rishimikiye ku nyigisho nk'iyi yasaba ukwitanga kurengeje, kandi bihambirira ku makosa yabo, bihenda ubwabo kandi bahenda abandi.

Gusubiriza ubweranda bw 'umutima n'umubiri idini ryo hanze biracanezereza abantu batahindutse muri kamere nk'uko vyari mu bihe vy'abo bigisha b'Abayuda. Uyu musi, nk'uko vyari muri ico gihe, hari abarongozi mu vya Mpwemu b'ibinyoma, inyigisho zabo zihurumbirwa na benshi. Ni igikorwa ca Satani kuyovya abantu abakura ku vyizigiro vy'agakiza kava kuri Kristo no kwitondera ivyagezwe vy'Imana. Muri buri runganwe uwo mwansi akomeye ategura ibigeragezo vyiwe afatiye ku vyiyumviro no ku vyifuzo vy'abo arondera kuzimiza. Mu bihe vy'intumwa yateje Abayuda gushira hejuru ivyagezwe vy'imigenzo no kwihakana Kristo; muri iki gihe naho ateza abantu benshi biyita Abakristo bihenda ngo bubaha Imana, guhonyanga ivyagezwe cumi vy'Imana n'ukwigisha ko bishobora guhonyangwa ntihabe igihano. Ni igikorwa c'umusuku w'Imana guhangana yivuye inyuma n'abo bantu bonona ukwizera, [202]

no kwerekana badatinya amakosa yabo bishimikije ijambo ry'ukuri.

Kugira ngo bene Data b'i Galatiya bongere kumwizera, Paulo yabemangiye ko ari intumwa ya Kristo. Yavuze ubwiwe ko ari intumwa, «nta muntu yabariwe kuntuma, ariko natumwe na Yesu Kristo, n'Imana Data wa twese yamuzuye mu bapfuye.» Ntiyatumwe n'abantu, ahubwo yatumwe n'Umunyecubahiro wo mw'ijuru. Kandi ivyo vyari vyemejwe n'inama nkuru y'i Yerusalemu igihe bemera ibikorwa Paulo yakoreye mu banyamahanga.

Nti kwari ukwishira hejuru, ahubwo kwari ugushira hejuru ubuntu bw'Imana, kwatumye Paulo yiyerekana gutyo imbere y'abahakana ko ari intumwa, abereka ko «intumwa zihambaye cane ata co zimurusha na gato.» 2 Ab'i Korinto 11:5. Abagerageza gukengera uguhamagarwa kwiwe n'igikorwa ciwe bariko barwanya Kristo yari yagaragaje ubuntu bwiwe n'ububasha bwiwe muri Paulo. Iyo ntumwa vyabaye ngombwa, kubera abansi biwe bamurwanya, gufata ingingo yo kwerekana umwanya n'ububasha bwiwe.

Paulo yinginze abari baratahuye ubushobozi bw'Imana mu buzima bwabo, gusubira ku rukundo rwabo rwa mbere bakunda ukuri kw'ubutumwa bwiza. Yaberetse mu majambo ntahinyuzwa amahirwe yabo yo kuba abagabo n'abagore bidegemvya muri Kristo, abamwihebeye bose bambikwa ikanzu y'ubugororotsi biciye mu mpongano y'ikimazi c'ubuntu bwiwe. Yerekanye ko umuntu wese azokizwa ategerezwa kumenyera neza ibintu vy'Imana.

Aya majambo akomeye yo kwinginga y'iyo ntumwa ndyabaye impfagusa. Mpwemu Yera yakoranye ubushobozi, maze benshi mu bari bazimiye bagaruka ku kwizera ubutumwa bwiza kwa mbere. Gutyo rero bahagaze mu mwidegemvyo, kuko Kristo yari yababohoye. Mu buzima bwabo higaragaje ivyamwa vya Mpwemu- «urukundo, umunezero, amahoro, ukwihangana, kugira neza, ingeso nziza, kuba umwizigirwa ubugwaneza, ukwirinda.» Izina ryTmana ryarahawe icubahiro, kandi benshi muri ako karere biyongeye ku gitigiri c'abizera.

# Ikigabane ca 37: Urugendo Rwa Nyuma Rwa Paulo I Yeru Salemu

*Iki Kigabane Gisliimikiye ku Vyakozwe 20:4; 21:16.*

Paulo yifuza cane gushika i Yerusalemu imbere ya Pasika kugira ngo abonereho akaryo ko guhura n'aboza bavuye mu mihingo yose y'isi guhimbaza iyo sabukuru. Yama afise icizere ko kumbure yoshobora gukura mu bo i wabo ivyiyumviro bishizemwo bidatomoye, bakizera umuco ntangere w'ubutumwa bwiza. Yifuza kandi [203]
guhura n'ishengero ry'i Yerusalemu kandi akabashikiriza ingabire zarungitswe n'amashengero y'abanyamahanga barungikiye bene Data b'i Yudeya. Kandi muri uru rugendo yizera kunyw&nisha Abayuda n'abanyamahanga bakiriye ukwizera. Amaze kurangiza igikorwa ciwe i Korinto, yafashe buno nyene ingingo yo gufata ubwato agana kimwe mu bivuko vyo ku nkengera ya Palestina. Integuro zose zari zakozwe, kandi yari agira yurire ubwato, niko kubwirwa ko Abayuda bateguye kumwica. Muri kahise abo bansi b'ukwizera bari barateshejwe mu twigoro twabo twose two guhagarika igikorwa c'iyo ntumwa. Ukuroranirwa kwo kuvuga ubutumwa bwiza kwatumye Abayuda bongera gushavura. Mu bihande vyose vy'igisagara hava inkuru zivuga ko inyigisho nsha zakwiragiye zibuza Abayuda gukurikira imihango y'ivyagezwe kandi zigaha uburenganzira abanyamahanga amahirwe angana n'ayo Abayuda, yo kuba abana ba Aburahamu. Paulo mu nsiguro ziwe i Korinto, yigishije ibintu bisa n'ivyo yagerageje kwandika mu makete yiwe. Amajambo yiwe yashize ko akatuzo ngo «Aho ntihaba Umugiriki canke Umuyuda, uwakebwe canke uwutakebwe» (Ab'i Kolosayi 3:11), abansi biwe bayafashe nk' ukurogota ku Mana gukabije, maze bafata ingingo ko ijwi ryiwe riherengetera.

Amaze kugabishwa kuri ubwo bwicanyi, Paulo yahisemwo kuzimguruka aca mu nzira y'i Makedoniya. Integuro ziwe zo gushika i Yerusalemu igihe ca Pasika vyabaye ngombwa ko ayiheba, ariko yizera ko azohashika kuri Pentekote. Abajanye na Paulo na Luka ni

«Sopatero w'i Beroya; n'abo i Tesalonike ni Arisitariko, na Sekundo, bo na Gayo w'i Derube, na Timoteyo, n'abo muri Asiya ni Tukiko na Tirofimo.» Paulo yari afise amahera menshi avuye mu mashengero y'abanyamahanga, yari ageneye gushikiriza bene Data barongoye igikorwa muri Yudeya; ku bwo ivyo yateguye ko abo bene Data baserukira ayo mashengero yatanze iyo mfashanyo bamuherekeza i Yerusalemu.

I Filipi Paulo yarahatebeye ngo yubahirize Pasika. Luka wenyene ni we yasigaranye na we, abandi mu bari bamuherekeje bamutangira imbere i Tirowa bamurindiriraho. Abafilipi ni bo bari bafise urukimdo n'umutima utagira uburyarya kuruta abandi bose iyo ntumwa yigishije ubutumwa bwiza, kandi muri iyo misi umunani y'isabukuru, yashimishijwe no kubana na bo mu mahoro n'ubumwe.Bafashe ubwato bava i Filipi, Paulo na Luka bashikiriye i Tirowa bagenzi babo bababaherekeje haheze inyuma y'imisi itanu, hanyuma bamarana imisi indwi n'abizera. baho. Ku mugoroba wa nyuma w'iyo misi bahamaze, abavandimwe «bakoranira kumanyagura imitsima.» Kubera umwigisha wabo mukundwa yategerezwa kugenda, vyatumye hakoranira abantu benshi kuruta uko bisanzwe. Bakoranira mu «cumba co mu nzu yo hejuru» ku
[204] gisenge ca gatatu. Kubera urukundo n'igishika yari abafitiye, Paulo yarasiguye ashitsa mu gicugu.

Mw'idirisha rimwe ryari ryuguruye hari hicaye umusore yitwa Eyutuko. Aremerwa n'itiro ryinshi arasinzira, maze akorokera mu kibuga hasi. Ubwambere bose barakomye akaruru babura ayo bacira n'ayo bamira. Nya musore bamuyora yapfuye, maze abantu benshi begera ikiziga ciwe barira bitsa umutima. Ariko Paulo, aca hagati y'abo bantu batekewe n'ubwoba, aramugumbira, arasenga yinginga ngo Imana imusubize ubuzima. Imana yarumvise ugutakamba kwiwe. Hejuru y'induru y'amarira no gucura intimba bumvise ijwi ry'iyo ntumwa, rivuga ngo «Mureke gukoma induru, kuko ubugingo bwiwe bukiri muri we.» Abizera n'umunezero mwinshi bongera gukorana mu cumba co hejuru. Basubira kumanyagura umutsima, bararya, kandi Paulo «ayaga na bo igihe kirekire ashitsa mu macaca.»

Ubwato Paulo n'abamuherekeje bategerezwa kugendamwo bwari bwegereje kugenda, maze abo bavandimwe bihutira kwurira. Ariko Paulo we, ahitamwo gufata inzira ya hafi urwo am-

aguru, hagati ya Tirowa na Aso, ahura n'abamuherekeje mu gisagara ca nyuma. Ibi vyamuhaye akanya ko kwiherera no gusenga. Ingorane n'akaga kajanye n'urwo rugendo rw'i Yerusalemu, inyifato y'amashengero kuri we n'igikorwa ciwe, hamwe n'uburyo amashengero yifashe, n'igishika abantu bafitiye igikorwa c'ubutumwa bwiza mu tundi turere, vyari ibintu biteye umwitwarariko n'ivyiyumviro, maze aboneraho ako karyo kadasanzwe ko kurondera Imana ngo imuhe inkomezi kandi imuyobore. Ubwo izo ngenzi zagana mu bumanuko ziva muri Aso, zaciye mu gisagara ca Efeso, aho iyo ntumwa yari yarakoreye. Paulo yari yarifuje cane kugendera amashengero yaho, kuko yari afise inyigisho n'impanuro zihambaye kuri bo. Ariko abiravye abona bibereye ko yokwihuta, kuko yifuza ngo «ni vyaba bishoboka umusi wa Pentekote uze ushike ari i Yerusalemu.» Ariko ari i Mileto, nko ku birometero mirongo ine na bitanu ngo ugere i Efeso, yumva ko bishoboka ko yoganira n'ishengero imbere y'uko ubwato bushika. Niko kwihuta kurungikira ubutumwa abakuru b'amashengero, abasaba kwihutira i Mileto, ngo abonane na bo imbere yo gukomeza urugendo. Inyishu ni uko baje, maze avugana na bo ashimitse. Ashirako amajambo y'impanuro n'ayo gusezera. Yavuze ati «Murazi ingene nabana namwe na ntaryo, uhereye umusi natanguriye gushika muri Asiya, nkorera Umwami wacu n'umutima wicishije bugufi, kandi ndira, nterwa n'ibingerageza ku bwo inama z'Abayuda. Kandi murazi yuko ata jambo ribereye nacishije i ruhande kubabwira canke kubigishiriza imbere y'abantu mu nzu no mu yindi, nshingira Abayuda n'Abagiriki intahe y'ukwihana mu nyonga z'Imana, n'ukwizera Umwami wacu Yesu Kristo.»

Paulo na ntaryo yashize hejuru ivyagezwe vy'Imana. Yari [205]
yaraberetse ko ivyagezwe bidafise ubushobozi bwo gukiza abantu igihano c'ubugarariji. Abakora ibibi bategerezwa kwihana ivyaha vyabo kandi bakicisha bugufi imbere y'Imana, babereye uburake bwiwe kubera bahonyanze ivyagezwe vyiwe, kandi bategerezwa kwizera amaraso ya Kristo ko ari yo nzira yonyene bashobora kuronkeramwo ikigongwe. Umwana w'Imana yari yapfuye nk'ikimazi cabo kandi yari yaduze mw'ijuru guhagarara imbere ya Se nk'umuvugizi wabo. Ku bwo kwihana n'ukwizera bashobora gukira igihano c'ivyaha kandi biciye mu buntu bwa Kristo bashobora kuyoboka ivyagezwe vy'Imana.

Paulo arakomeza ati «None raba, ngiye i Yerusalemu mboshwe mu mutima, ntazi ibizombako nshitseyo: atari uko Mpwemu Yera anshingira intahe mu gisagara cose yuko ingoyi n'ivyago bintegeyeyo. Ariko simbababaye ubuging;o bwanje nk'aho ari ubwo igiciro, kugira ngo ndangize urugendo rwanje, n'igikorwa nahawe n'Umwami Yesu, co gushingira intahe ubutumwa bwiza bw'ubuntu bw'Imana. Kandi none raba, ndazi yuko mutazosubira kubona mu maso hanje, abo naciyemwo mwese ndababwira ivy ubwami bw'Imana.»Paulo ntiyari yateguye gushinga iyi ntahe; ariko, igihe yariko aravuga, Mpwemu amuhumeka yamujeko, yemeza ubwoba bwiwe ko ubu bubaye ubwa nyuma bene Data b i Efeso bamubona. «Nico gituma mbashingira intahe uyu musi ncuna, yuko amaraso ya bose atazonkora. Kuko ntaciye i ruhande mbabwira ivyo Imana yagabiye vyose.»

Nta gutinya kubakomeretsa, nta kwifuza ubucuti canke gushimwa, vyari kubuza Paulo kuvuga amajambo Imana yari yamuhaye ngo abahanure, abagabishe, canke abakosore. Imana isaba ko abasuku bayo uyu musi basigura ijambo ryayo badatinya kandi bashira mu ngiro amategeko yaryo.

Umukozi wa Kristo ntasabwa gushikiriza abantu ukuri kubaryohera gusa, ngo areke ibindi vyoshobora kubababaza. Ategerezwa kwihweza neza ingene kamere yabo ikura. Iyo abonye mu mukuku w'Imana hari umuntu akuyakuya icaha, ategerezwa nk'umwungere w'umwizigirwa gutanga inyigisho ihwanye n uko bameze. Abaretse ngo babandanye inzira zabo atabagabishije, azobazwa imitima yabo. Umupasitori arangura ibanga rihambaye yahamagariwe ategerezwa guha abantu biwe inyigisho itomoye ku kintu cose kijanye n'akwizera Rukristo, abereka ico bategerezwa kuba n ico bategerezwa gukora ngo bahagarare batagira agasembwa ku musi w'urubanza rw'Imana. Uwabaye umwigisha w'ukuri w umwizigirwa ni we wenyene ku mpera y'igikorwa ciwe ashobora kuvuga nka Paulo ati «amaraso ya bose ntazonkora.»

[206] Iyo ntumwa yahanuye bene Data ati «Mwirinde ubwanyu, muzigame n'ubusho bwose Mpwemu Yera yabashizemwo, ngo mube abo kubuzezwa, kugira muragire ishengero ry'Imana iryo yaguze amaraso yayo.» Iyaba abakozi b'ubutumwa bwiza bokwamye batahura ko bajejwe abo Kristo yaguze amaraso yiwe, bobonye ko igikorwa cabo gihambaye cane. Bategerezwa kwirinda

no kurinda ubusho bwabo. Akarorero kabo gategerezwa kuba icitegererezo no gushimangira inyigisho bigisha. Nk'abigisha b'inzira y'ubugingo ntibokora ikintu na kimwe cotuma ukuri kuvugwa nabi. Nk'ivyariho vya Kristo bategerezwa kugumiza hejuru icubahiro c'izina ryiwe. Mu kwitanga kwabo, ubuzima bwabo butagira agasembwa, ibiganiro vyabo vyubaha Imana, bategerezwa kwerekana ko babereye umuhamagaro wabo uhambaye.

Akaga kazogeramira ishengero ry'i Efeso Paulo yaragahishuriwe. Yavuze ati, «Ndazi yuko ninamara kuhava, amabingira y'mkazi azobinjiramwo atababaye umukuku, kandi no muri mwebwe ubwanyu hazokwaduka abantu bavuga ibigoramye kugira ngo bakwegere abigishwa inyuma yabo.» Paulo yahinze agashitsi abonye muri kazoza ibitero ishengero rizoronka, bivuye ku bansi bo hagati canke bo hanze yaryo. Yabinginze ashimitse ngo birinde, bazigame ivyera babikijwe. Yabahaye akarorero abereka ibikorwa yakoreye muri bo adahumeka: Nuko mwame mugavye, mwibuke ko namaze imyaka itatu ntasiba guhanura umuntu wese ndira, ku murangono mw'ijoro.

Yarabandanije ati «Kandi none mbaragije Imana n ijambo ry'ubuntu bwayo, rishobora kububaka no kubahera ibiragwa hamwe n'abejejwe bose. Nta co nipfuje, ari ifeza, ari izahabu, ari ivyambarwa vy'umuntu n'umwe.» Bamwe muri bene Data b'i Efeso bari batunze, ariko Paulo ntiyigeze abaronderako inyungu yiwe. Nti vyari mu nyigisho ziwe kwereka abantu ingorane ziwe. Yemanze ati «Aya maboko yanje yankenuranye ivyo nkeneye n'abo turi kumwe.» Hagati y'ibikorwa vyiwe biruhije n'ingendo ziwe nyinshi ku bwo igikorwa ca Kristo, ntiyashoboye kwikenura gusa, ahubwo yashoboye no gushira i ruhande ivyo gufashisha abo bikorana n'ukugarukira aboro nyakuri. Ibi yabishoboye ku bwo kwama na ntaryo aziganya. Vyari vyoroshe rero kwitangako akarorero avuga ati «Nabahaye akarorero muri vyose, yuko mu buruhe nk'ubwo, ariho mukwiye gufasha abadakomeye, no kwibuka amajambo y Umwami Yesu, ingene ubwiwe yavuze ati Gutanga kuzana umugisha kuruta guhabwa. «Amaze kuvuga atyo, arapfukama, asengera hamwe nabo bose. Bose bararira cane, bagwa Paulo mw'izosi, baramugumbira, cane cane bababajwe n'ijambo yababwiye ngo ntibazosubira kumubona mu maso. Maze baramuherekeza, bamugeza ku bwato,» Bavuduka i Mileto mu bwato «baramiriza baja i Kosi, bukeye bw'aho bafata i

Rodo, bavayo bafata i Patara,» ku kiv.uko c'amaja epfo y'uburengero
[207] bwa Asiya ya Hafi, «basangaho ubwato bugira bujabuke buja i Foyinike, babutambukiramwo, baragenda.» I Tiro, aho bari bagabiye gukurira ibintu mu bwato, bahasanze abigishwa, basibirayo imisi indwi bari kumwe nabo. Biciye kuri Mpwemu Yera, abo bigishwa bavugishijwe ivyo akaga karindiriye Paulo i Yerusalemu, maze «babarira Paulo ngo yoye kuja i Yerusalemu.» Ariko iyo ntumwa ntiyemeye ko ubwoba bw'amakuba n'umunyororo bumubuza intumbero yiwe.

Barangije iyo misi indwi bamaze i Tiro, abavandimwe bose, n'abagore n'abana babo bose, bajana na Paulo ku bwato, maze imbere y'uko burira ubwato, bapfukama ku musenyi barasenga, bamusengera nawe abasengera. Bakomeza urugendo bagana mu bumanuko, bashika i Kayisariyo, maze «binjira mu nzu ya Fihpo umuvuzi w'ubutumwa bwiza, n'umwe muri ba bandi indwi, baka indaro i we.» Aho Paulo yahamaze imisi y'umunezero n'amahoro-imisi ya nyuma y'umwidegemvyo yanezererewe igihe kirekire. Igihe Paulo yari agitevye i Kayisariyo, «haza uwuvugusihwa n'Imana yitwa Agabo. Adushikiriye, niko Luka avuga, «Yakira umukanda wa Paulo, awibohesha amaguru n'amaboko, aravuga, ati Uku ni ko Mpwemu Yera agize: nyene uyu mukanda, uku ni ko Abayuda bazomubohera i Yerusalemu, bazomushira mu maboko y'abanyamahanga.» Luka arabandanya ati «Maze twumvise ivyo, twebwe n'abantu baho turamwinginga ngo ntaduge i Yerusalemu.» Ariko Paulo ntiyava ku rizima. Vyari ngombwa ngo akurikire Kristo haba mw'ibohero canke mu rupfu. Arasemerera ati «Mukora ibiki, kundirira mundandura umutima? Siniteguye kuboherwa gusa i Yerusalemu, ariko no gupfirayo, ku bwo izina ry'Umwami Yesu.» Babonye ko bamuteye akababaro ariko batari buhindure intumbero yiwe, bene Data baramureka, gusa bavuga ngo «Ivyo Umwami agomba ni bibeho!»

Igihe kirashika umwanya muto twahagaze i Kayisariyo urarangira, Paulo, aherekejwe na bamwe mu bigishwa, baja i Yerusalemu, imitima yabo yuzuye agahinda ku bwo ibibi biteze kzohura na vyo. Nta na rimwe iyo ntumwa yari bwigere yegera Yerusalemu ifise agahinda nk'ako. Yari azi ko azohura n'abagenzi bakeya n'abansi benshi. Yari yegereje igisagara cahakanye kandi kikica Umwana w'Imana kandi ubu cimirije gusukwako uburake

bw'Imana. Yibutse ingene yari afitiye ivyiyumviro bitari vyo abigishwa ba Kristo, yumvise afitiye akagongwe bene wabo bazimiye. Ariko yari afise ivyizigiro bike cane vyo kubafasha! Bwa burake bw'impumyi bwarurumba mu mutima wiwe, ubu naho bwari burushirije kwaka mu mitima y'igihugu cose kimurwanya. Kandi ntiyashobora n'ukwitega impuhwe n'ubufasha bwa bene Data mu kwizera. Abayuda bahakanye ukwizera bari bamukurikiranye, ntibari bahengeshanije kumudodobereza i Yerusalemu, bo ubwabo canke mu makete, ku vyiwe n'igikorwa ciwe; kandi bamwe, no mu ntumwa n'abakurambere, bari bavyakiriye nk'ukuri, ntibager- [208]
ageza kubivuguruza, ntiberekana n'icifuzo co kumushigikira. Ariko n'aho yacitse intege, iyo ntumwa ntiyihebuye. Yizera ko ijwi ryari ryavugiye mu mutima wiwe rizovugira mu mitima ya bene wabo, kandi ko Umwigisha abigishwa biwe bakunda kandi bakorera bazohuza imitima n'uwiwe mu gikorwa c'ubutumwa bwiza.

## Ikigabane ca 38: Paulo Imbohe

*Iki kigabane Gishimikiye ku Vyakozwe 21:17 Gushika 23:35*

«Dushitse i Yerusalemu, bene Data batwakirana umunezero. Bukeye bw'aho Paulo yinjirana na twe kwa Yakobo, abakuru bose ni ho bari.» Paulo n'abo bagendanye baboneraho akaryo ko gushikiriza ku mugaragaro abarongozi b'igikorwa i Yerusalemu imfashanyo zatanzwe n'amashengero y'abanyamahanga ngo bashigikire aboro bo muri bene Data b'Abayuda. Gukoranya izi mfashanyo vyari vyasavye iyo ntumwa n'abo bakorana umwanya munini, imyitwarariko n'uburuhe. Ayo mahera, yari arengeye cane ayo abakuru b'i Yerusalemu bari biteze, yasobanura ukwitanga gukomeye, mbere n'ukwiyima kw'abizera bavuye mu banyamahanga.

Aya mashikanwa avuye ku mutima ubikunze yagaragaza Ubuyoboke abizera b'abanyamahanga bari bafitiye uburongozi bw'igikorawa c'Imana mw'isi yose, kandi ategerezwa kuba yakiriwe na bose n'umutima ushima, ariko vyagaragaye kuri Paulo no kuri bagenziwe ko hari muri abo bantu bari bahagaze imbere yabo harimwo bamwe batashoboye gushima umutima wa kivandimwe wari watumye batanga izo mfashanyo.

Mu myaka ya mbere y'ubutumwa mu banyamahanga, bamwe muri bene Data b'abarongozi b'i Yerusalemu, bakomeza kwihambirira ku vyiyumviro n'urwikeko ataho bihagaze, ntibashigikiye Paulo n'abagenziwe n'umutima wose. Ku bwo kurondera kuzigama bimwe mu mihango n'ivya kera, bari bibagiye imihezagiro yari kubazako bo n'igikorwa bakunda cane, mu kigoro ko guhuza impande zose z'igikorwa c'Umwami. Naho bifuza cane kurinda inyungu z'ishengero rya Kristo, bari bananiwe kujana n'iterambere ry'uburongozi bw'Imana, maze mu bwenge bwabo bwa kimuntu bagerageza kuremereza abakozi ibintu vyinshi bidakenewe. Nuko hahaguruka abantu batamenyereye ihinduka kandi batazi ingorane abakozi bo mu mashengero ya kure bahwana nazo, ariko kandi bavuga bashimitse ko bafise ububasha bwo kurongora bene Data bo

muri utwo turere tw'ivugabutumwa ngo bakurikize uburyo runaka bwo gukora.

Biyumvira ko igikorwa co kuvuga ubutumwa bwiza gitegerezwa gukorwa mu buryo buhwanye n'ivyiyumviro vyabo.

Imyaka myinshi yari yaheze kuva aho bene Data b'i Yerusalemu, [209] hamwe n'abaserukira ayandi mashengero akomeye, bari batanze ivyiyumviro vyabo ku bibazo vyari vyavyutse ku vyerekeye uburyo bwakurikizwa n'abakorera mu banyamahanga. Inyuma y'iyo nama, bene Data bari bemeranije mu gutanga impanuro zitomoye zerekeye imihango n'imigenzo imwe imwe, harimwo n'uwo gukebwa. Ni muri iyi nama ya bose bene Data kandi bari bemeranije mu gusaba amashengero ya Kristo kwakira Paulo na Barunaba nk'abakozi babereye kwizigirwa n'umwizera wese. Mu bari muri iyo nama, hari bamwe bari banebaguye uburyo bwo gukora intumwa zikorera mu banyamahanga zakurikiza mu kubabwira ubutumwa bwiza. Ariko muri iyo nama, ivyiyumviro vy'abo ku mugambi w'Imana vyari vyagutse, maze bafatanya na bene Data mu gufata ingingo zituma abizera bose banama rimwe.

Mu nyuma, igihe vyagaragara ko abizera bava mu mahanga bariko bariyongera vuba-vuba, hari bamwe muri bene Data barongoye igikorwa i Yerusalemu bongeye kugaruka kuri vya vyiyumviro vya kera vy'umwikeko birwanya uburyo Paulo na bagenziwe bakurikiza. Ibi vyiyumviro bitari vyo, bikomejwe n'imyaka myinshi yari ihaciye, gushika aho bamwe mu barongozi bafata ingingo ko igikorwa co kuvuga ubutumwa uhereye ubwo gitegerezwa gukurikiza ivyiyumviro vyabo. Paulo niyemera kujana n'amategeko bashira imbere ngo bazemera igikorwa ciwe kandi bagishigikire; ngo naho bitabaye bityo ntibazongera kukiraba neza n'ukugishigikira. Abo bantu bari bibagiye ko Imana ari yo Mwigisha w'abantu bayo; ko umukozi wiwe umwe umwe wese ategerezwa kuronka ubumenyi bwiwe bwite mu gukurikira Imana nk'Umurongozi, atishimikije uburongozi bw'abantu; ko abakozi biwe bategerezwa gukora no kugenda, atari nk'uko ivyiyumviro vy'umuntu bisaba, ahubwo nk'uko Imana ibishaka.

Mu gikorwa ciwe co kuvuga ubutumwa, Paulo yari yigishije abantu «atari mu majambo y'ubwenge yo kwemeza abantu ahubwo vyaserukamwo Mpwemu n'ubushobozi.» . Ukuri yamamaza yari yaguhishuriwe na Mpwemu Yera, «Mpwemu asesa vyose,

n'ibihishijwe vy'Imana. Ni nde mu bantu azi ibiri mu muntu, atari impwemu yiwe, iri muri we? Ni ko n'ivy'Imana biri, nta wubizi, atari Mpwemu w'Imana. . . . Paulo avuga ati «Navyo nyene turabivuga, ariko ntitubivuga mu majambo yigishwa n'ubwenge bw'abantu, ariko tubivuga mu yigishwa na Mpwemu, tugereranya ivy'impwemu n'ivy'iyindi mpwemu.» 1 Ab'i Korinto 2:10-13.

Mu gikorwa ciwe co kuvuga ubutumwa, Paulo yari yisunze Imana ngo imubere umuyobozi. Hamwe n'ivyo, yari yitwararitse gukora yisunze ingingo z'inama nkuru y'i Yerusalemu, kandi ku bwo ivyo amashengero menshi «akomerezwa mu kwizera, agenda
[210] yunguka ibitigiri imisi yose.» Ivyakozwe 16:5. None ubu naho, atitayeho irarirari bamwe bamweretse, yaremeshejwe n'ugutahura ko yari yakoze igikorwa ciwe mu guhimiriza mu bakiriye ubutumwa umutima w'ubwizigirwa, wo gutanga, n'urukundo rwa kivandimwe, nk'uko vyigaragarije mu mfashanyo yashoboye gushikiriza abakurambere b'Abayuda.

Amaze gushikiriza izo ngabire, Paulo «ababarira ivyo Imana yakoze mu banyamahanga imukoresheje.» Ivyo yabadondaguriye vyakoze ku mitima ya bose, n'abari bamye bakekeranya, bemera ko imihezagiro y'ijuru yari yaherekeje ibikorwa vyiwe. «Nabo bavyumvise bahimbaza Imana.» Batahuye ko uburyo iyo ntumwa yakoresha bwari bwemewe n'Imana. Imfashanyo zari imbere yabo zashigikiye igishingantahe c'iyo ntumwa cerekeye ubwizigirwa bw'amashengero masha yashinzwe mu banyamahanga. Ba bantu, naho baharurwa mu barongoye igikorwa i Yerusalemu, bari bategetse ko ingingo zitagira urufatiro zifatwa, zibona igikorwa ca Paulo mu muco musha kandi bemera ko inyifato yabo itari yo, ko bari baboshwe n'imigenzo n'imihango ya Kiyuda, kandi ko igikorwa c'ivugabutumwa cari caboshwe kubwo kudatahura ko igihome catandukanya Abayuda n'abanyamahanga cari cabomowe n'urupfu rwa Kristo.Ako kabaye akaryo keza kuri bene Data bose b'abarongozi kwatura vy'ukuri ko Imana yari yakoreye muri Paulo, kandi ko vyashitse bakazimira mu kureka ko ibirego vy'abansi biwe bibatera ishari n'urwikeko. Ariko aho kwambika izera uwo bari bakomerekeje, bamuhaye impanuro yerekana ko n'ubu bakomeje kwiyumvira ko aha nini Paulo ari we yatumye bamwiyumvirako ibintu bitari vyo. Ntibahagaze rugabo ngo bamushigikire, mu kwereka abari bagize nabi aho bihendeye, ahubwo barondera umwumvikano

mu kumuhanura ngo akurikize inyifato yotuma ivyiyumviro vyose vyo kumubona nabi bivaho.

Bavuze ngo «Urabona, mwene Data, ingene Abayuda bizeye ari ibihumbi vyinshi; kandi bose bagira ishaka ry'ivyagezwe. Kandi babariwe ivyawe, yuko wigisha Abayuda bose bari mu banyamahanga guheba ivya Mose, ukavuga ngo ntibakwiye gukeba abana babo canke kugendera mu migenzo yacu. None icobimara ni iki? Ntibazobura kwumva ko waje. Nuko genza utya, uko tukubwira. Dufise abagabo bane bari n ico basezeranye. Ubajane wihumanurane na bo, ubaterere, ngo babone kwimosha maze bose bazomenya ko nawe ubwawe ugenda witonze, witondera n'ivyagezwe. Yamara ivyo abizeye bo mu banyamahanga, twanditse dushinze ko birinda kurya ivyaterekerejwe ibigirwamana, bo n'amaraso, bo n'ibinizwe, birinde no gusambana.»

Bene Data bizera ko Paulo, mu gukurikiza iyo nyifato bamuhanuye, yovuguruza ibirego bitandukanye bamuvuzeko. Bamwemereye ko ingingo y'inama yakoranye yerekeye abizera b'abanyamanga n'ivyagezwe vy'imihango y'urusengero, vyaban- [211]
danije. Ariko impanuro batanze ntiyari ihwanye n'iyo ngingo. Mpwemu w'Imana si we yabahaye iyo mpanuro; iyo mpanuro yari itewe n'ubwoba. Abarongozi b'ishengero ry'i Yerusalemu bari bazi ko badakurikije imihango y'ivyagezwe, Abakristo botuma Abayuda babazinukwa, maze bakikwegera agahamo. Sentare nkuru y'Abayuda yariko ikora uko ishoboye kwose kugira ngo ibuze iterambere ry'ubutumwa bwiza. Abantu bari baratowe.ngo bakurikirane intumwa, cane cane Paulo, ngo bakore igishoboka cose kurwanya igikorwa cabo. Abizera Kristo barezwe imbere ya Sentare nkuru y'Abayuda ko bahonyanga ivyagezwe, bari guhanwa bimwe vy'akarorero nk'abataye ukwizera kwa Kiyuda.

Benshi mu bakiriye ubutumwa bwiza bakomeje gukurikiza ivyagezwe vy'imihango, kandi bari biteguye gukurikiza ibintu bidatomoye ngo bikundwakaze kuri bene wabo b'Abayuda, bizera ko muri ubwo buryo bohanagura urwikeko rwabo, n'ukubazana ku kwizera Kristo nk'Umucunguzi w'isi. Paulo yatahuye ko igihe cose abarongozi b'ishengero ry'i Yerusalemu bazokomeza kumwikeka, bazobandanya igikorwa ciwe. Yiyumviriye ko namba vyoshoboka ko bumvikana ku bintu ataco vyokwica, yoshobora kubumvisha ukuri akavana mu nzira intambamyi nini yabuza iteram-

bere ry'ubutumwa bwiza mu bindi bibanza. Ariko Imana ntiyamwemerera ko ajana na bo mu vyo basaba vyose.

Iyo twiyumviriye icifuzo ca Paulo co kubana amahoro na bene Data, ubugwaneza ku badakomeye mu kwizera, icubahiro yaha intumwa zabanye na Kristo, na Yakobo yavukana n'Umwami, n'intumbero yiwe yo kuba vyose kuri bose ariko adateye kubiri n'amategeko- iyo twiyumviriye ivyo vyose, ntibitangaje kubona vyabaye ngombwa ko ava ku rizima, agatera kubiri n'ingendo yari yakurikiye gushitsa n'ubu. Ariko aho gushika ku co yari yifuje, utwigoro twiwe two guhuza n'abandi twamuteje ingorane, twihutisha imibabaro yiwe, bituma atandukana na bene Data, atuma ishengero ritakaza imwe mu nkingi zikomeye, kandi bizanira agahinda Abakristo mu gihugu cose. Umusi ukurikira Paulo atangura gushira mu ngiro impanuro z'abakurambere. Ba bagabo bane bari musi y'isezerano ry'ubunaziri (guharura 6), ikiringo cabo cari kigiye kurangira, bajanwa na Paulo mu rusengero, «avuga igihe imisi yo guhumanurwa izoshikira, agenza atyo gushitsa aho ikimazi c'umuntu wese muri bo catangiwe.» Ibimazi bimwe bizimvye vyo kwihumanura ntivyari bwatangwe.

Abari bahanuye Paulo kugenza atyo ntibari batahuye neza akaga kamurindiriye. Muri ico gihe, Yerusalemu yari yuzuye abaje gusenga bo mu mihingo nyinshi. Ku bwo igikorwa Imana yari yamuhaye, Paulo yari yarabwiye ubutumwa abanyamahanga, yari
[212] yaragendeye vyinshi mu bisagara binini vyo mw'isi, kandi yari azwi n'ibihumbi vy'abantu bava mu turere tw'abanyamahanga twose bari baje i yerusalemu kw'isabukuru. Muri abo bantu harimwo abagabo banka Paulo urunuka, kandi kuri bo kubona Paulo yinjira mu rusengero ku mugaragaro kwari ukwigerezako. Imisi myinshi yaraheze yinjira asohoka hagati y'abasenga, bisa n'uko batamukubita urugohe; ariko igihe c'iyo misi indwi igira ishire, ubwo yariko aravugana n'umuherezi ku vyo ibimazi bizotangwa, Abayuda bamwe bavuye muri Asiya baramumenya.

Bamusimbirako n'ishavu ry'abadayimoni, batabaza ngo, «Bagabo b'Abisirayeli, mudutabare: Ngo uyu muntu yigisha hose abantu bose, akengereza ubu bwoko n'ivyagezwe n'aha hantu.» Maze ubwo abantu bishura uwo muhamagaro, ikindi kirego ciyongerako-«ikigeretseko, yazanye n'Abagiriki mu rusengero, yahumanije aha hantu hera.»Ku bwo amategeko ya Kiyuda, cari icaha

gihanishwa urupfu ku muntu atakebwe kwinjira mu bibuga vyo hagati y'ingoro yera. Bari babonye Paulo mu gisagara ari kumwe na Tirofimo, w' Umunyefeso maze bibwira ko yamujanye mu rusengero. Nta vyo yari yakoze;kanatsinda we nk'Umuyuda, kwinjira mu rusengero nti kwari ukwica icagezwe. Naho ivyo bamurega vyari ibinyoma, vyatumye igisagara cose kivurungana. Ubwo akamo kasamiraniye mu rusengero, abo bantu bakoranye nk'ibirandamuke. Inkuru ica yamamara muri Yerusalemu yose, «igisagara cose kiravurungana, abantu barashwabaduka.»

Kwumva ngo Umwisirayeli w' umuhakanyi yubahutse guhumanya urusengero mu gihe ibihumbi vyari vyakoranye biva mu mihingo yose y'isi baje gusenga, vyatumye abantu bamera nk'inyamaswa. «Basumira Paulo, baramukwega bamukura mu rusengero: ako kanya bugara inzugi.» Bakirondera ingene bamwica, inkuru ishika ku mukuru w'abasoda yuko abo muri Yerusalemu bose bavurunganye.» Kalaudiyo Lusiyo yari azi uko imitwe y'abo bantu imeze, maze aca ajana abasoda n'abagabisha babo, abamanukira yihuta: Nabo babonye uwo mukuru w'intwazangabo n'abasoda, basigaho gukubita Paulo.» Naho atari azi imvo z iyo mivurungano, ariko abonye ko iryo sinzi ry'ibirandamuke rirondera Paulo, iyo ntwanzangabo y'Abaroma yibwiye ko ateregezwa kuba Umunyamisiri yumvise ko yateye umugararizo mu gihe gishize, yari yatorotse ibohero. Nuko rero «aramufata, avuga ko bamufatisha iminyororo ibiri, abaza uwo ari we, n'ico yakoze ico ari co.» Buno nyene haza uruyogoyogo n'amajambo y'ishavu yo kumurega; «bamwe ukwabo abandi ukwabo: abujijwe n'uruyogoyogo kumenya ukuri, avuga ko bamujana mw'iboma. Ashitse ku ngazi y'amabuye abasoda baramuterura ku bwo ubusugurirwe bw'abantu. Kuko ishengero ry'abantu ryabaja inyuma, basemerera, kuraho uyo.» -

Hagati y'iyo mivurungano iyo ntumwa yari itekereje, idahunga- [213]
bana. Umutima wiwe wari uhanze amaso Imana, kandi yari azi ko abamarayika b'ijuru bari kumwe na we. Yiyumva ko adakwiye kuva mu rusengero atabwiye ukuri bene wabo b'Abayuda. Bagira bamushikane mw'iboma, Paulo abaza umukuru w'intwazangabo, ati Wonkundira ijambo nkubarira?» Lusiyo yishura ati «Urazi Ikigiriki? Si wewe wa Munyamisiri yateye umugararizo mu gihe gishize, akajana mu bugaragwa abantu b'abicanyi ibihumbi bine? Paulo aramwishura ati «Ndi Umuyuda, umuntu w'i Taruso igisagara c'i

Kihkiya kitayoberanye: none ndakwinginze unkundire ico mbarira abantu.» Amukundiye, «Paulo ahagarara ku ngazi y'amabuye, yamama abantu.» Ico kimenyetso yagize catumye abantu bumviriza, kandi nawe ubwiwe yari ahagaze nk'umuntu yiyubashe. «Hamaze kuba agacerere rwose, ababarira mu Giheburayo ati, «Yemwe bagabo bene Data kandi ba data, ni mwumvirize ivyo nireguza muri mwebwe. Bumvise avuga amajambo y'Igiheburayo bamenyereye, «barushiriza gucereza,» nawe arabandanya bose bacereje ati: «Ndi Umuyuda, navukiye i Taruso h'i Kilikiya, ariko nakuriye muri iki gisagara, nigishirizwa imbere y'ibirenge vya Gamahyeh nk'uko uruhande rugoye rw'ivyagezwe ruri, ngira ishaka ry'Imana, nk'uko namwe mwese murifise uyu musi.» Nta n'umwe yashobora guhakana amajambo y'iyo ntumwa, kuko ivyo yababwira vyari bizwi n'abantu benshi bari bakiba i Yerusalemu. Nuko ababwira ishaka yahoranye ryo guhiga abigishwa ba Kristo, mbere no gushika abice; kandi ababwira ingene yahindutse Umukristo, abwira abamwumviriza ingene umutima wiwe w'ubwibone wagondojwe ukunamira Umunazareti yabambwe. Iyo agerageza guharira n'abamurwanya, bari guca bishira hejuru bakanka kwumviriza amajambo yiwe; ariko ivyo yavuga vyamubayeko vyarimwo ubushobozi bubemeza ku buryo mu kanya kamwe basa n'uko boroshe kandi bicishije bugufi.

Aherako agerageza kubereka ko igikorwa ciwe co gukorera mu banyamahanga kitavuye ku guhitamwo kwiwe.. Yari yifuje gukorera igihugu ciwe; ariko muri urwo rusengero nyene havuye ijwi ry'Imana rivugana na we nko mw'iyerekwa, maze rihindura inzira yarimwo «ntumwa kure ku banyamahanga.» Kugeza ngaha bari bamwumviriza neza, ariko Paulo ageze kw'ijambo aho avuga ko yatumwe kuba icariho ca kristo ku banyamahanga, ishavu ryongera riraziriringa. Kuko bari bamenyereye kwibona nk'ihanga ryo nyene ryagiriwe ubuntu n'Imana ntibemera kureka ngo abanyamahanga basangire na bo imigisha babona ko ari iyabo bonyene. Baduza amajwi yabo hejuru y'ijwi rya Paulo, basemerera ngo «Kura Uwumeze atyo mw'isi: nakare ntiyari abereye kubaho.» «Bamaze kumubohesha imigozi, Paulo abaza umukuru w'intwazangabo w'abasoda ijana ahagaze aho, ati Mbega biremerewe ko mukubita umuntu
[214] w'Umuroma, kandi ata rubanza rwamutsinze? Iyo ntwazangabo ivyumvise, ija ku mukuru w'intwazangabo, arabimumenyesha, ati

ugira ukore iki? Erega wa muntu ni Umuroma. Uwo mukuru w'intwazangabo araza, aramubarira ati Jewe naguze ubwo buroma amahera menshi. Paulo ati Ariko jeho nabuvukiyemwo. Nuko abari bagiye kumucaca baca baramureka; umukuru w'intwazangabo na we aratinya, amenye ko ari Umuroma, kandi yamuboshe.

«Bukeye bw'aho, agomvye kumenya neza ico Abayuda bamurega ico ari co, aramubohora, agera ko abaherezi bakuru bakorana n'abanyekombe bose, amanukana Paulo, amuhagarika imbere yabo.»Iyo ntumwa yari igiye gucibwa urubanza na sentare we ubwiwe yahoze ari umwe mu bayigize imbere y'uko ahindukirira Imana. Ubwo yahagarara imbere y'abategetsi b'Abayuda, yari atekanye, mu maso hiwe hagaragaza amahoro ya Kristo. «Ahanga amaso abanyekombe,» avuga ati «Bagabo bene Data, namanye umutima utarimwo ijwi rinyagiriza ikibi na kimwe imbere y'Imana gushitsa kuri uyu musi. Bumvise ayo majambo, urwanko rwabo rwongera kuvyuka; «maze Ananiya, umuherezi mukuru abarira abamuhagaze i ruhande ku mukubita ku munwa. Kuri iryo tegeko bunyamaswa, Paulo asemerera ati «Imana izogukubita, wa rusika rukuyengejweko ingwa: mbega wewe ko wicaritswe kuncira urubanza nk'uko ivyagezwe biri, ugatako ukavuga ko bankubita ukanyuranya n'ivyagezwe?» «Abari bahagazeho, bati Mbega uratuka umuherezi mukuru w'Imana? Paulo mu rupfasoni asanganywe yishura ati, «Si nari ndamuzi, bene Data, ko ari umuherezi mukuru: kuko handitswe ngo Ntukavuge nabi umukuru wo mu bwoko bwanyu.

«Maze Paulo amenye yuko umuce umwe ari uwo Abasadukayo, uwundi uwo Abafarisayo, ashira ijwi hejuru mu banyekombe, ati Bagabo bene Data, ndi Umufarisayo, ndi umwana w'Abafarisayo: ivyizigiro vy'ibizoba n'ukuzuka kw'abapfuye ni vyo bimpagaritse muri izi manza. «Avuze atyo, haduka ibihari mu Bafarisayo n'Abasadukayo, abanyarukinja birema ibice. Kuko Abasadukayo bahakana yuko ata kuzuka kuriho, canke abamarayika n'impwemu; ariko Abafarisayo bavyemera vyompi.» Izo mpande zibiri zitangura guharira, gutyo inkomezi z'ukurwanya Paulo ziba ziraheze. «Bamwe mu banyabwenge b'ivyanditswe bo mu muce w'Abafarisayo bava hasi baraharira, bati Nta kibi twabonye kuri uyu muntu: ariko namba impwemu canke umumarayika yavuganye na we, ni mureke rero ntiduhave turwanya Imana.»

Mu bizazane vyakurikiye, Abasadukayo bagerageje uko bashoboye ngo bacakire Paulo bamwice; ariko abafarisayo bo bagerageza gukora uko bashoboye ngo bamukingire. «Umukuru w'intwazangabo z'abasoda atinye ko bogabangana Paulo, abarira ingabo ngo zimanuke, zimujane mw'iboma.»Mu nyuma, igihe
[215] yiyumvira ku vyabaye mu rubanza rw'uyo musi, Paulo atangura gutinya ko kumbure inyifato yiwe yoba itashimishije Imana. Yoba yagize ikosa mu kugenda i Yerusalemu? Icifuzo ciwe co kwiyunga na bene Data coba ari co cateye iyi ngaruka iteye ubwoba? Inyifato Abayuda nk'ubwoko bw'Imana bafata imbere y'abanyamahanga yateye Paulo agahinda kenshi. Abo bategetsi b'abapagani bababona gute?- kwirata ko basenga Yehova, kandi ko bakora igikorwa cera, ariko bakemera gutwarwa n'ishavu ry'uruhumyi ritagira umutwe n'amaguru, barondera no kwica bene wabo bubahuka gutandukana na bo mu kwizera kw'idini, kandi bagahindura inama y'urubanza imbuga y'imitongano n'urudubi. Paulo yumva ko izina ry'Imana yiwe ryatutswe mu maso y'abapagani. None ubu yari mw'ibohero, kandi yari azi ko abansi biwe, kubera baburaniwe mu buryarya bwabo, bazorondera inzira zose zishoboka ngo bamwice. Vyoba ari vyo ko igikorwa ciwe ku bwo amashengero cari kirangiye kandi ko amabingira y'inkazi yari agiye kwinjira? Paulo yaritwararika cane igikorwa ca Kristo, maze yiyumvirana umwitwarariko akaga kazoza ku mashengero asanzaye, ageramiwe n'agahamo k'abantu nk'abo yarl yahuye nabo muri sentare nkuru y'Abayuda. Yicwa n'agahinda n'ugucika intege, aherako ararira kandi arasenga.

Muri iyo saha y'umwiza, Umwami ntiyari yirengagije umushumba wiwe. Yari yamurinze ibirandamuke vy'abicanyi mu bibuga vy'urusengero; yari yabanye na we imbere ya sentare nkuru y'Abayuda; yari kumwe na we mw'iboma; kandi yihishuriye icabona ciwe c'intungane mu kwishura amasengesho y'iyo ntumwa igihe yasaba ko amuyobora. «Ijoro ry'uwo musi, Umwami Yesu amuhagarara hejuru, ati Humura; nk'uko wanshingiye intahe i Yerusalemu, ni ko ukwiye kuzonshingira intahe i Roma.»Paulo yari yarifuje kenshi kugendera i Roma; yifuza kuhashingira intahe Kristo, yari yabonye ko umugambi wiwe waburijweyo n'urwanko rw'Abayuda. Ntiyibaza mbere n'ubu ko azojayo ari imbohe. Ubwo Umwami Yesu yaremesha umusuku wiwe, abansi ba Paulo bobo bariko baraja imigabo yo kumwica. «Iryo joro rikeye, Abayuda

barakorana, barahira bisiba yuko batazorya ndbanywe batarica Paulo. Abahize batyo basaga mirongo ine.»

Uku kwisonzesha kwasa na kumwe Uhoraho yagaya aciye mu kanwa ka Yesaya-ukwisonzesha kw'amahane n'imitongano, no gukubitana ibipfunsi vyo kugiriranira nabi.» Yesaya 58:4.

Abahize kumwica «baja ku baherezi bakuru n'abakui u, bati Twarahiye twisivye bikomeye yuko ata co tuzotamira tutarica Paulo. Nuko rero mwebwe n'abanyekombe, ni mubwire umukuru w'intwazangabo z'abasoda amubamanukanire, nk'abarondera gutahura ivyiwe neza. Natwe, atarabashikira, twiteguye kumwica.»Aho kwiyamiriza uyu mugambi w'ubwicanyi, abaherezi n'abatware bemera uwo mugambi. Paulo yari yavuze [216]
ukuri igihe yagereranya Ananiya n'urusika rukuyengejweko ingwa. Ariko Imana yahagaze hagati ikingira ubuzima bw'umusuku wayo. Umwishwa wa Paulo, yumvise «uwo mutego» w'abo bicanyi, «araza ashika mw'iboma, abibarira Paulo. Paulo ahamagara umwe mu ntwazangabo z'abasoda ijana, ati jana uyu muhungu ku mukuru w'intwazangabo z'abasoda; afise ijambo amubarira. Nawe aramujana amushira uwo mukuru w'intwzangabo, ati Va mbohe Paulo yampamagaye aranyinginga, ngo nkuzanire uyu muhungu, afise ico akubarira.»

Kilawudiyo Lusiya yakira neza uwo muhungu, aramwihereranya, aramubza ati, «Ico ufise kumbarira ni iki? Wa muhungu yishura ati,

«Abayuda bahuje inama yo kukwinginga ngo ejo uze umanukane Paulo mw'ikombe, nk'uwugomba kubaza ivyiwe ngo urushirize kubimenya neza. None rero ntuje kubumvira, kuko abantu babo basaga mirongo ine bamuryamiye, barahiye bisivye ko batazorya ntibanywe bataramwica: kandi none bariteguye, barorereye ico uribubemerere.»Uwo mukuru arungika uwo muhungu, amaze kumwihanikiriza, ati Ntugire umuntu ubarira yuko umenyesheje ivyo.» Buno nyene Lusiyo aca afata ingingo yo gukura Paulo mu karere atwara amunmgike mu karere karongowe na Feliki, icegera ca Kayisari. Abayuda bari ubwoko bukunda kugumuka, kandi imivurungano kuri bo vyari ibintu bisanzwe. Kuba Paulo akomeje kuboneka i Yerusalemu vyari kuzana inkurikizi mbi ku gisagara mbere no kuri uwo mutegetsi ubwiwe. Nuko «ahamagara babiri bo mu ntwazangabo z'abasoda ijana, arababarira, ati ni mwitegure aba-

soda amajana abiri bo kuja i Kayisariyo, n'abagendera ku mafarasi kugira ngo bayashireko Paulo, bamushikane kwa Fehki icegera ca Kayisari akiri muzima.»

Nta mwanya wo gutakaza mu kurungika Paulo. «Nuko abasoda bafata Paulo uko babariwe, bahenga mw'ijoro bamujana muri Antipatiri.» Bagezeyo, basigayo abagendera ku mafarasi, ngo abe ari bo bajana nawe i Kayisariyo, ba basoda amajana ane basubira i Yerusalemu. Umukuru w'intwazangabo yarongora uwo mugwi ashikiriza iyo mbohe Feliki, amuha n'ikete yari yaherejwe n'umukuru w'intwazangabo: «Jewe Kilawudiyo Lusiya ndakuganutsa wewe Fehki umwubahwa, icegera ca Kayisari. None uyu mugabo Abayuda bari bamaze kumuta mu maboko ngo bamwice, nanje menye ko ari Umuroma nzanana n'ingabo ndamubakiza. Kandi nshatse kumenya ico bamurega, ndamumanukana mw'ikombe ryabo. Mbona yuko bamurega amajambo y'ivyagezwe vyabo, ariko ko ata co yarezwe gikwiye kumwicisha canke kumubohesha. Maze mbariwe yuko bahigiye uwo mugabo, nca ndamukurungikira, mbarira abarezi ko bamuregera imbere yawe. Ndakwikebanuye.» Amaze gusoma iryo kete, Feliki arondera kumenya intara
[217] Paulo akomokamwo, maze yumvise ko ari uwo i Kilikiya, avuga ati, «Nzokwumviriza. . . abarezi bawe ni bamara kuza. Agera ko bamurindirira mw'iboma ya Herode.» Ivyo vyashikiye Paulo ntivyari ivya mbere, aho umusuku w'Imana aronkera ubuhimgiro mu bapagani, agakingirwa ubwicanyi bw'abiyita ubwoko bwa Yehova. Mu kurakarira Paulo, barushirije kwongereza ububi ku bantu bariko bagaragaza kahise kabo. Babandanije gukomantaza imitima yabo bagwanya ukuri, maze iryavuzwe kuri bo riba riratashe.

Ni bake batahura ubusobanuro bw'amajambo Kristo yavuze, igihe yatangaza mw'isinagogi i Nazareti ko ari Uwasizwe Amavuta. Yatangaje igikorwa yatumwe co kuremesha, guhezagira, no gukiza abari mu kababaro n'abanyavyaha; maze abonye ubwibone n'ukutizera vyaranga abamwumviriza, niko kubibutsa ko mu bihe vyashize Imana yateye umugongo ubwoko bwiwe yatoranije kubera ukutizera n'ubugarariji, kandi ko yiyeretse abo mu bapagani batanse kwakira umuco w'ijuru. Wa mupfakazi w'i Zarefati na Namani Umusiriya bari bagendeye mu muco wose bari bararonse; gutyo rero baharuwe nk'abagororotse kuruta ubwoko Imana yatoranije bari barihakanye Imana kandi bagaheba amategeko yayo ngo bironkere

icubahiro c'isi. Kristo yabwiye Abanyanazareti ukuri guteye ubwoba igihe yavuga ko Isirayeh yasubiye inyuma itazoha nirwere intumwa itunganye y'Imana. Ntibazotahura akamaro canke ngo bishimire ibikorwa vyiwe. Naho abarongozi b'Abayuda bigamba ko bafitiye umwete icubahiro c'Imana n'ineza ya Isirayeli, bari abansi b'Imana n'ab'Isirayeli. Mu mvugo no mu ngiro, barongora abantu kure y'ukwubaha Imana-babayobora aho itashobora kubarwanira ku musi w'akaga.

Amajambo Umukiza yabwiye Abanyanazareti abihaniza yari ukuri, ku biraba ivyashikiye Paulo. Nti yari ukuri ku Bayuda batizera gusa, ahubwo no kuri bene Data mu kwizera. Iyo abarongozi b'ishengero baheba ivyiyumviro bibi bafitiye iyo ntumwa, maze bakamwakira nk'intumwa idasanzwe y'Imana yo kubwira ubutumwa bwiza abanyamahanga, Umwami yari kumubazigamira. Imana ntiyari yategetse ko ibikorwa vya Paulo bihagarara vuba gutyo, ariko nta gitangaza yakoze ngo ibuze ingorane abarongozi b'ishengero rya Kristo i Yerusalemu bari bateje.

Umutima nk'uwo n'ubu uracafise ingaruka zisa n'izo. Kwirengagiza gushima n'uguteza imbere ingabire z'ubuntu bw'Imana vyanyaze ishengero imigisha myinshi. Ni kenshi Umwami yohaye igihe kirekire umukozi w'umwizigirwa ngo akore igikorwa ciwe, iyo ibikorwa vyiwe bishimwa! Ariko iyo ishengero riretse ngo umwansi w'imitima yonone ugutahura, maze bakiyumvira ukutari ko amajambo n'ibikorwa vy'umusuku wa Kristo; iyo biyemeje kumubera intambamyi kandi bakamubuza ico yomara, Umwami rimwe na [218]
rimwe abaka imihezagiro yari yarabahaye. Satani yama na ntaryo akorera mu bikoresho vyiwe ngo avune umutima kandi arandure abantu Imana yatoranije ngo bakore igikorwa gihambaye. Bashobora n'ukuba biteguye guheba ubuzima bwabo ku bwo iterambere ry'igikorwa ca Kristo, ariko wa mubeshi mukuru azoshira mu mitwe ya bene Data gukekeranya kuri bo, ku buryo ivyo vyiyumviro bibandanije bishobora gutuma. babakurako icizere no gukekeranya ko ari intungane muri kamere kabo, ivyo navyo bigasubiza inyuma akamaro kabo. Kenshi Satani arashobora kubateza imibabaro abicishije muri bene Data, ku buryo Imana mu buntu bwayo ibanguranya mu guha akaruhuko umusuku wayo ageramiwe n'itotezwa. Ibiganza bimaze kurambikwa ku mutima wiwe wahagaze gutera, igihe rya jwi ryababurira kandi rikabaremesha ryashengereye mu gacerere,

ba bantu bikomantaje imitima bashobora kwuguruka amaso kandi bagatahura agaciro k'imihezagiro banyazwe. Urupfu rwabo rushobora gukora ico ubuzima bwabo butashoboye gukora.

## Ikigabane ca 39: Urubanza Rw'i Kayisariya

*Iki kigabane Gishimikiye ku Vyakozwe 24*

Imisi itanu ishize Paulo ageze i Kayisariya, abarezi biwe baza bava i Yerusalemu, baherekejwe n'uwo kubavuganira yitwa Teritulo. Urwo rubanza baruravye vuba-vuba. Paulo amaze kurengutswa, Teritulo «atangura kumurega.» Yiyumviriye ko akarimi gasosa ko kumutaka kogira inkomezi kuri uwo mutware w'Umuroma kuruta kuvuga amajambo y'ukuri n'ubutungane, iyo mvuzi y'indyadya ibanza guhayagiza Feliki: «Ni ku bwawe igituma tugazagaza mu mahoro menshi, n'ibindi vyaroranirijwe ubu bwoko ku bwo imigabo yawe: nuko turavyemera uburyo bwose ahantu hose, FeUki umwubahwa, tugukengurukiye cane.»

Teritulo ng'aha yihayo ububeshi butagira kwiyorobeka; mu vyo ukuri Feliki yari afise kaivtere igayitse. Inkuru zavuga ko «mu bushurashuzi bw'ubwoko bwose n'ubwicanyi, yakoresha ububasha bw'umwami n'ingeso z'umugurano.»- Tacitus, History, ch.5, par.9. Abumvise Teritulo batahuye ko ayo majambo yo kumutaka atari ukuri, ariko icifuzo cabo co kurondera icotsindisha Paulo cari gifise inkomezi kuruta gukunda ukuri. Mw'ijambo ryiwe, Teritulo yaremetse Paulo ivyaha, iyo bigaragara ko ari ukuri vyari gufatwa ko ari ivyo kugambanira Leta. Uwo muvugizi yemanze ngo «Twabonye uyu muntu ari ikiza, atera umugararizo Abayuda bose bari mu bihugu vyose, ni we remezo ry'igice c'Abanazareti. Kandi yagejeje no guhumanya urusengero.» Teritulo aca avuga ko Lusiya, umukuru w'intwazangabo z'abasoda b'i Yerusalemu,» ' 218» yashikuye [219]
Paulo mu minwe y'Abayuda bagira ngo bamucire urubanza nk'uko ivyagezwe vyabo bivuga, abategeka kuza imbere ya Feliki. Ayo majambo yari agendereye kwosha icegera ca Kayisari gufata ingingo yo kurekurira Abayuda ngo bacire Paulo urubanza. Ibirego vyose vyashigikiwe n'Abayuda bose bari aho, batagize akigoro ko guhisha urwanko bafitiye iyo mbohe.

Feliki yari afise ubwenge buhagije bwo gusoma ivyifuzo na kamere k'abarezi ba Paulo. Yari abizi afatiye kuri ya majambo

bamubwira yo kumutaka, kandi yarabonye ko batashoboye gutanga ivyemezo vy'ibirego baremetse Paulo. Ahindukirira uwo bashengeje amusaba ko yiyishurira ubwiwe. Paulo ntiyatakaje amajambo mu kumushimagiza, ahubwo yavuze gusa ko anezerewe kuba yokwiregura imbere ya Fehki, kubera uwo yabaye icegera ca Kayisari kuva kera, ku buryo ashobora gutahura neza ivy'ivyagezwe n'imigenzo vy'Abayuda. Yisunze ivyo bamureze, yerekanye neza ko ata na kimwe muri vyo ari ukuri. Yemanze ko atigeze atera imidurumbanyo mu gice na kimwe c'i Yerusalemu, canke ngo ahumanye urusengero. Yavuze ati «Ntibasanze mparira n'umuntu n'umwe, canke nkoraniriza abantu kubakikiza, naho hoba mu rusengero canke mu masinagogi canke mu gisagara: kandi ku vyo bandeze ubu, ntibashobora kuronka ikinyagiriza imbere yawe.»

N'ubwo yemera gukurikira inzira «bita ko ari igice» yakorera Imana ya ba sogokuruza biwe, yemeza ko yamye yemera vyose bifatanije n'ivyagezwe kandi vyanditswe mu vy'abavugishwa n'Imana;» kandi ko nk'uko ivyanditswe bivuga, yizera ko hazoba ukuzuka kw'abapfuye. Yongeye ko kandi ko mu ntumbero y'ubuzima bwiwe akobereza «kugira umutima utamwagiriza ikibi ku Mana no ku bantu. Yavuze ata budyadya kandi adaca i ruhande intumbero yiwe yo kuza i Yerusalemu, n'icatumye bamufata bakamushengeza: «Maze imyaka myinshi ishize, njanwayo no gushira ubwoko bwacu ivy'ubuntu, no gutanga ibimazi. Nkiri muri vyo bansanga mu rusengero nihumanuye, ata bantu nkoranije, ata n'urwamo ruriho. Ariko hari Abayuda bamwe bavuye muri Asiya, ni bo bari bakwiye kuza hano imbere yawe no kundega, iyaba bafise ico bangaya. Canke na bano na bo ni bavuge icaha bambonyeko, aho nari mpagaze imbere y'abanyekombe, kiretse rya jambo rimwe navuze n'ijwi rirenga mpagaze muri bo, nti Ukuzuka kw'abapfuye ni kwo kumpagaritse muri izi manza imbere yanyu uyu musi.»

Iyo ntumwa yavuga ata budyadya , ifise ukuri kugaragara, kandi amajambo yiwe yari afise ububasha ku buryo yatera kunyurwa. Kilawudiyo Lusiya, mw'ikete ryiwe rya nyuma yandikiye Feliki, yari yashinze intahe isa n'iyo ku vyerekeye inyifato ya Paulo. Ikigeretseko, Feliki ubwiwe yari azi idini y'Abayuda kuruta uko benshi bavyibaza. Amajambo ya Paulo kuri urwo rubanza yafashije
[220] Feliki gutahura mbere cane intumbero yatumye Abayuda bagerageza kwemeza Paulo ko yagumuye abantu kandi agashaka kugambanira

ubutegetsi. Uwo mutegetsi ntiyari yiteguye kubaha uburenganzira bwo gutsindisha umwenegihugu w'Umuroma canke kububahura ngo bamwice ata tohozwa n'urubanza biciye mu kuri. Ariko Feliki yakunda inyungu ziwe kuruta ibindi vyose, kandi yategekwa no kurondera icubahiro no kwifuza kuduzwa amapete. Gutinya kubabaza Abayuda vyamubujije kwambika izera umuntu yari azi ko ata kibi kimwagira. Nuko ahitamwo kuba ahagaritse urubanza gushika igihe Lusiya azozira, «Lusiya umukuru w'intwazangabo z'abasoda ni yaza, nzoca urubanza rw'amajambo yanyu.» Iyo ntumwa yagumye ari imbohe, ariko Feliki ategeka uwatwara abasoda ijana yari ashinzwe kurinda Paulo, «kumurinda urw'amaso,» no «kutabuza n'umwe mu bagenzi biwe kumukorera canke kumugarukirako.»Nti vyatevye ko Feliki n'umugore wiwe Durusila batumako Paulo ngo bavugane mu mwiherero «ku vyo ukwizera Kristo.» Bari n'umwete n'inyota vyo kwumviriza ivyo uku kuri gusha- batazokwigera bongera kwumva, kandi ni bagutera umugongo, kuzobagiriza ku musi w'urubanza rw'Imana.

Paulo yari yabibonye nk'akaryo Imana imuhaye, kndi yaragakoreshje neza. Yari azi ko ahagaze imbere y'umuntu afise ubushobozi bwo kumwicisha canke kumubohora; ariko ntiyabwiye Feliki na Durusila amajambo yo kubahayagiza canke kubasiga amavuta. Yari azi ko amajambo yiwe yari afise akanovera k'ubuzima canke ako urupfu, maze, ariyibagira n'inyungu ziwe zose, arondera kubumvisha akaga kabarindiriye. Iyo ntumwa yatahuye ko ubutumwa bwiza bufise ububasha ku muntu wese yumviriza amajambo yiwe; ko umusi uri izina bazohagarara mu bagororotsi n'aberanda imbere y'intebe ihambaye yera, canke bagahagarara ku ruhande rw'abo Kristo azobwira ngo «Mviraho, mwa bakora ibizira mwe.» Matayo 7:23. Yari azi ko ategerezwa guhura n'umwe umwe wese mu bamwumvirije imbere y'intebe y'imanza yo mw'ijuru kandi ko ategerezwa kubazwa, atari gusa ku vyo yavuze canke yakoze, ahubwo na ku mvo n'umutima vyasunitse amajambo n'ibikorwa vyiwe.

Feliki yari y?.anzwe n'uburandamuke n'ubwicanyi ku buryo ari bake bari bashoboye kwubahuka kumubwira ko afise amakosa. Ariko Paulo ntiyatinya umuntu. Yamweretse neza ukwizera afitiye Kristo, n'impamvu y'ukwizera kwiwe, maze ashika no kuvuga ivyerekeye ingeso zikomeye ziranga kamere Rukristo, ariko abo bantu babiri bari imbere yabo batagira namba. Yashize hejuru im-

bere ya Feliki na Durusila kamere y'Imana-ubugororotsi bwayo, ubutungane bwayo, ukutarenganya kwayo, na kamere k'ivyagezwe vyayo. Yaberetse neza ko ari igikorwa c'umuntu kubaho ubuzima
[221] mu kwirinda ibiboreza no mu kwigerera, gukoresha ubwenge mu gutegeka ivyifuzo vy'umubiri nk'uko ivyagezwe vy'Imana bisaba, n'ukuzigama inkomezi z'umubiri n'izo ubwenge ngo bigumane amagara meza. Yemanze ko ata nkeka hariho umusi w'urubanza aho abantu bose bazohembwa ibikwiranye n'ivyo bakoze bakiri mu mubiri, kandi ko bizogaragara ko ubutunzi, ibiti, canke ivyubahiro bidashobora gufasha umuntu kwemerwa n'Imana canke kumukiza ingaruka z'icaha. Yaberetse ko ubu buzima ari igihe umuntu yahawe ngo yitegurire ubuzima buzoza. Niyafata minenerwe aya mahirwe n'aka karyo azovyicuza ataco ari buhindure, kuko ata kandi karyo azohabwa.

Paulo yashimangiye cane ku vyo ivyagezwe vy'Imana bisaba. Yerekanye ingene bikora no ku mabanga ahambaye y'ubuzima butagira agasembwa kandi bigakora no ku bihishijwe amaso canke ubwenge bw'abantu. Ivyo amaboko ashobora gukora canke ururimi rushobora kuvuga-ivyo ubuzima bwo hanze buhishura-vyerekana agasase gusa ka kamere y'umuntu imbere y'amabwirizwa y'Imana. Itegeko ry'Imana rigenzura ivyiyumviro, imvo, n'intumbero. Ivyifuzo vy'umubiri binyegejwe amaso y'abantu, ishari, urwanko, kwifuza, kurwanira gushika ku bihambaye, ibikorwa bibi twiyumvira mu bwihisho bw'umutima, n'aho tutoba twarabishize mu ngiro kuko twabibuze canke tutaronse akaryo ko kubikora-ivyo vyose itegeko ry'Imana rirabitunga urutoke.

Paulo yagerageje kwumvisha abamwumviriza ca Kimazi gikuru c'impongano y'icaha. Yerekanye ibimazi vyari ibitutu vy'ivyiza bizoza, kandi yerekana Kristo nk'uwo iyo mihango yose yagereranya-ni we vyose vyerekana nk'isoko y'ubuzima n'ivyizigiro vy'umuntu yaguye. Aberanda ba kera bakijijwe ku bwo kwizera amaraso ya Kristo. Ubwo babona ibimazi biboroga vyicwa, baraba kure cane bakabona Umwagazi w'intama w'Imana akura icaha c'abari mw'isi. Imana iri mu kuri mu gusaba ko ivyaremwe vyayo biyikunda kandi biyigamburukira. Yaberetse mu vyagezwe vyayo urugero rwuzuye rw' ibitunganye. Ariko benshi bibagira Umuremyi wabo kandi bagakurikira inzira zabo zinyuranye n'ubugombe bwayo. Bayisubiza urwanko ku rukundo rwayo rufise uburebure

bungana n'ijuru kandi rukagira ubwaguke bungana n'uko isi ingana. Imana ntishobora kugabanya ibisabwa n'amategeko yayo ku bwo gushikira urugero rw'abanyakibi; nk'uko umuntu nawe adashobora mu nkomezi ziwe gukwiza ibisabwa r'negeko ry'Imana. Mu kwizera Kristo gusa ni ho umunyavyaha yczwa, akurwako igihano c'ivyaha kandi agashobozwa kwitondera ivyagezwe vy'Umuremyi wiwe.

Paulo, iyo mbohe, yasaba rero ko Abayuda n'abanyamahanga bitondera amategeko y'Imana, kandi yerekana Yesu, Umunyanazareti yakengerewe, nk'Umwana w'Imana, Umukiza w'abari mw'isi. Uwo muganwakazi w'Umuyuda yaratahura neza kamere yera y'iryo tegeko yari yarahonyanze bimwe biteye isoni, ariko ivyiyumviro bitari vyo yari afise kuri uvvo Muntu w'i Kaluvari [222]
vyakomantaje umutima wiwe imbere y'ijambo ry'ubugingo. Ariko Feliki we, ntiyaribwigere yumviriza ukuri, kandi, ubwo Mpwemu w'Imana yamwemeza mu mutima wiwe, yaciye abura amahoro. Umutimanama wiwe warikanguye, wumvikanisha ijwi ryawo, maze Feliki yumva ko amajambo ya Paulo yari ukuri. Yaciye yibuka ibibi yakoze imbere. Ibihishijwe vyo mu buzima bwiwe bwa kera vyahagaze bwuma imbere yiwe, ubusambanyi n'ugusesa amaraso, n'ivyo yakoze mu myaka yiwe ya nyuma. Yibonye ko ari igihumbu, umwicanyi, n'inkunzi y'amahera. Nta na rimwe vyari bwashike ngo ukuri kumucumite mu mutima nk'uko. Nta na rimwe umutima wiwe wari bwatekerwe n'ubwoba. Iciyumviro ko amabanga y'akazi kiwe yarangwa n'ubwicanyi yagaragaye mu maso y'Imana, kandi ko ategerezwa gucibwa urubanza ruhwanye n'ivyo yakoze, vyatumye ahinda umushitsi kubera ubwoba. Ariko aho kureka ngo kunyurwa kwiwe kumuzanire kwihana, yagerageje kwiyobagiza ivyo vyiyumviro bitaremesha. Umubonano wiwe na Paulo wabaye uwo akanya gato. Yavuze ati «Ubu niwigire, ni naronka uburyo bwiza nzogutumako.»

Raba itandukaniro riri hagati ya Feliki na wa murinzi w'ibohero w'i Filipi! Abasuku b'Uhoraho bazanywe kuri uwo murinzi baboshwe, nk'uko Paulo yaje imbere ya Feliki. Ivyemezo batanze ko bari bashigikiwe n'ubushobozi bw'Imana, umunezero wabo hagati y'imibabaro n'isoni, ugushira ubwoba kwabo igihe isi yahinda umushitsi, n'umutima wabo w'ikigongwe Rukristo, vyemeje umutima w' uwo murinzi w'ibohero, maze yatura ivyaha vyiwe ahinda

umushitsi kandi arababarirwa. Feliki yarahinze agashitsi, ariko ntiyihanye. Wa murinzi w'ibohero yakiranye umunezero Mpwemu w'Imana mu mutima wiwe no mu rugo rwiwe; Feliki yasavye iyo Ntumwa y'Imana ko yigira. Umwe yahisemwo kuba umwana w'Imana na samuragwa w'ijuru, uwundi ahitamwo gusangira umugabane n' inkozi z'ikibi.

Mu gihe c'imyaka ibiri cose, nta ngingo Paulo yafatiwe, ariko kandi yagumye ari imbohe. Feliki yamugendeye kenshi kandi yumvirije amajambo yiwe. Ariko imvo y'ukuri y'ubwo bucuti bwiyorobetse, kwari ukurondera inyungu, kandi yasavye ko Paulo atanga amahera menshi ngo abohorwe. Ariko iyo ntumwa yari itunganye ku buryo itemera kwibohoza igiturire. Nta caha na kimwe yiyagiriza, kandi ntiyari kwemera gukora icaha ngo aronke umwidegemvyo. Ikigeretseko,. yari akenye cane ku buryo atari kuronka amahera y'incungu angana atyo, n'aho yari kuba yobikora, kandi ntiyanashobora kubikora ubwiwe, canke kwitabaza bene Data yahinduje ubutumwa. Yumva kandi ko yari mu maboko y'Imana, kandi ntiyari yiteguye gukora ibiteye kubiri n'imigambi y'Imana kuri we.

Amaherezo Feliki yasabwe kuja i Roma, kubera ibibi yakoreye Abayuda. Imbere yo kuva i Kayisariya, yiyumviriye «kwikundisha
[223] ku Bayuda» mukurekera Paulo mw'ibohero. Ariko Feliki ntiyaroraniwe mu mugambi wiwe wo kugarura icizere mu Bayuda. Yakombowe nabi, maze Porukiyo Fesito amusubirira i Kayisariya. Umushwarara w'umuco wari wemerewe gukayanganira kuri Feliki, igihe Paulo yamusobanurira ivy'ubugororotsi kwigerera n'ivy'urubanza rugiye kuza. Ako kari akaryo kavuye mw'ijuru yari aronse ko kubona n'ukureka ivyaha vyiwe. Ariko yabwiye iyo ntumwa y'Imana ngo «Ubu niwigire, ni naronka uburyo bwiza nzogutumako.» Yari yakengereye ikigongwe ca nyuma yari ahawe. Nta wundi muhamagaro w'Imana azosubira kuronka.

## Ikigabane ca 40: Paulo Yiyambaza Kayisari

*lki kigabane Gishimikiye ku Vaykozwe 25:1-12.*

«Nuko Fesito ashikiriye intara amara gatatu, araheza ava i Kayisariya aduga i Yerusalemu. Abaherezi bakuru n'abahambaye bo mu Bayuda bamuregako Paulo, baramwinginga, bamusaba kubagirira neza kuri uyo, ngo amutumeko, aze i Yerusalemu.» Mu kumusaba batyo bari bagendereye kubundira Paulo ngo bamutsinde mu nzira ija i Yerusalemu bamwice. Ariko Fesito yari azi igikorwa ashinzwe n'igihagararo ciwe, maze mu bupfasoni yanka kurungika Paulo. Ababwira ati, «Si umugenzo w'Abaroma gutanga umuntu uwo ari we wese, uwuregwa atabanje kuba kumwe n'abamureze imbonankubone, no kubona uburyo bwo kwiregura ibirego bamureze.» Yavuze ko «na we ubwiwe agiye kuja i Kayisariya vuba.» «Nuko rero... ababishoboye nibamanuke tujane, namba hari ikibi kiri muri uyu mugabo bakimurege.»Iki si co Abayuda bashaka. Ntibari bibagiye ingene batashe zirayoye i Kayisariya. Imbere y' umutima utekanye n'amajambo ntahinyuzwa y'iyo ntumwa, umutima wabo w'ubudyadya n'ibirego vyabo bitagira umutwe n'amaguru noneho vyari kwigaragaza bikabije. Bongera gusaba ko Paulo aja gucibwa urubanza i Yerusalemu, ariko Fesito ntiyava ku ntumbero yiwe yo gucira urubanza rubereye i Kayisariya. Imana mu burongozi bwayo yategeka ingingo ya Fesito, kugira iyo ntumwa ibe iramaze kabiri. Babonye imigambi yabo ipfuye, Abakuru b'Abayuda buno nyene bitegura kurega Paulo muri sentare y'icegera ca Kayisari. Amaze imisi agarutse i Kayisari, inyuma y'imisi mike yabaye i Yerusalemu, Fesito «bukeye bw'aho yicara ku ntebe y'imanza avuga ko bazana Paulo.» «Abayuda bamanutse bava i

Yerusalemu baramukikiza, bamurega ibirego vyinshi bikomeye, ivyo badashobora kuronkera icagiriza. Kubera ko batari bafise uwubaburanira, Abayuda bahisemwo kwironderera ibirego vyabo. Ubwo urubanza rwabandanya, uwo aregwa yerekanye n'ubwitonzi n'umutima mu nda ko ivyo bamurega ari ibinyoma.

[224] Fesito yabonye ko ivyo bamurega biraba ivyagezwe vy'Abayuda, kandi ko umuntu abitahuye neza, ata kintu mu vyo barega Paulo, bashobora kuronkera ivyagirizi vyotuma acirwa urwo gupfa canke ngo apfungwe. Ariko yabonye neza umuriro wokwaka igihe Paulo atotsindishwa canke ngo amubarekurire. Nuko kugira «yikundirize Abayuda,» Fesito agaruka kuri Paulo, amubaza ko yokwemera kuja i Yerusalemu musi y'uburinzi bwiwe, ngo acirwe urubanza na Sentare Nkuru y'Abayuda. Iyo ntumwa yari izi ko ata butungane yiteze kuronka ku bantu ku bwo ubwicanyi bwabo bariko barikwegera uburake bw'Imana. Yari azi ko, nk'uko vyabaye ku wavugishwa n'Imana Eliya, vyoba vyiza ababarijwe hagad y'abapagani kuruta kubabarizwa hagati y'abateye umugongo umuco uva mw'ijuru kandi bagakomantaza unitima yabo imbere y'ubutumwa bwiza. Aruhijwe n'imitongano, abona ko atokwihanganira kuguma arindirizwa n'urubanza atabona iherezo ryarwo hamwe n'umunyororo. Nuko ahitamwo gukoresha uburenganzira bwiwe bw'Umuroma, bwo kwitwara kuri Kayisari.

Ku kibazo C'icegera ca Kayisari, Paulo yishuye ati: «Mpagaze aha imbere y'intebe y'imanza ishinzwe na Kayisari, niho nkwiye gucirwa urubanza. Nta kibi nagiriye Abayuda, kandi nawe urabizi neza. Nuko namba naragabitanije, canke narakoze ibikwiye kunyicisha, sinanka gupfa: ariko namba ivyo aba bandega atari ko biri, nta muntu ashobora kubampa. Nzokwitwara kuri Kayisari.» Fesito nta na kimwe yari azi ku migambi y'abayuda yo kwica Paulo, ni ko gutangazwa no kwumva ko ashaka kwitwara kuri Kayisari. Ariko amajambo y'iyo ntumwa yahagaritse ivy'urwo rubanza. «Fesito amaze kuja inama n abanyekombe, aramwishura, ati Ko ugomvye kwitwara kuri Kayisari, imbere ya Kayisari ni ho uzoja.» Uku ni ko kandi, bivuye ku rwanko rutewe n'ugutwarira hejuru kw'idini, no kwibona nk'abagororotsi, umusuku w'Imana yarungitswe kurondera uburinzi ku bapagani. Urwanko nk'urwo ni rwo rwatumye uwavugishwa n'Iman Eliya ahunga ngo aronkere ubufasha ku mupfakazi w'i Zarefati: Kandi ivyo vyatumye biba ngombwa ngo abamamaza ubutumwa bwiza bareke Abayuda maze baje kuvuga ubutumwa bwabo mu banyamahanga. Kandi uru rwanko, abantu b'Imana bo muri uru runganwe bazohura na rwo. Benshi mu biyita abigishwa ba Kristo barimwo ubwibone nk'ubwo, idini y'imigenzo, n'ukwikunda, wa mutima wo guhohotera abandi wari waratse indaro

mu mitima y'Abayuda. ' Muri kazoza, abantu biyita ivyariho vya Kristo bazokurikira inzira nk'iyo abaherezi n'abaganza bakurikiye mu kugirira nabi Kristo n'intumwa. Mu kaga bagiye gucamwo vuba, abasuku bayoboke b'Imana bazohura n'ubukomantare bw'umutima, ubwicanyi nk'ubwo butagondozwa, n'urwanko nk'urwo rutisubirako.

Abo bose kuri uwo musi mubi bazokorera Imana badatinya bagakurikiza amategeko y'umutima-nama wabo, bazokenera ubushizi bw'amanga, guhagarara bashikamye, n'ugutahura ubugombe bw'Imana n'ijambo ryayo; kuko abazohitamwo kwumira ku Mana bazohamwa, imvo zabo bazozikekeranya, utwigoro twabo duhambaye bazotwiyumvira ukutari ko, amazina yabo ahanagurwe nk'ayo abanyakibi. Satani azokora n'ubushobozi bwiwe bwose bw'ubuhendanyi ngo yoshe abantu kandi ahuvye ugutahura kwabo, kugira ngo ikibi kiboneke nk'iciza, n'iciza kiboneke nk'ikibi. Uko ukwizera kw'abantu b'Imana kuzoba gukomeye kandi kutagira agasembwa, n'ugushikama kwabo mu kuyigamburukira, ni ko Satani azosara mu kugerageza kubasukako uburake bwa barya bantu, biyita abagororotsi ariko bahonyanga ivyagezwe vy'Imana. Hazokenerwa ukwizigira kutayegayega, ubutwari, na kwa kwizera gukomeye kwahabwa aberanda ba mbere. [225]

Imana yifuza ko abantu bayo bitegurira akaga kagiye kuza. Bitegura, batitegura, bazohura na ko; kandi abo bonyene bigenjeje mu buzima bwabo nk'uko igipimo c'Imana gisaba, ni bo bazoshikama mu gihe c'igeragezwa n'imibabaro. Igihe abategetsi b'isi baziyunga n'abarongozi b'idini ngo batange amategeko mu biraba umutima-nama, aho ni ho hazobonekera abatinya vy'ukuri Imana n'abayikorera. Igihe umwiza uzocura kuruta ibindi bihe, ni ho umuco wa kamere y'Imana uzokayangana gusumba ibindi bihe. Igihe ibindi vyizigiro vyose bizohera, ni ho hazoboneka ababitse ivyizigiro kuri Yehova. Kandi igihe abansi b'ukuri bazosagiriza ku mpande zose, bagenza abasuku b'Uhoraho ngo baronke ikibi babarega, Imana izobagenzura ngo ibabonemwo iciza. Izobabera nk'igitutu c'igitandara kinini co mu bugaragwa.

## Ikigabane ca 41: Habuze Gato Ngo Umpxndure

*Iki Kigabane Gishimikiye ku Vyakozwe 25:13-27; 26.*

Paulo yari yitwaye kuri Kayisari, kandi Fesito nta kindi yari gukora kiretse kumurungika i Roma. Ariko igihe carashize hataraboneka ubwato bwiza; kandi, kubera abandi banyororo bategerezwa kurungikanwa na Paulo, ibi navyo vyatumye urugendo rwigizwayo. Ibi vyahaye Paulo akaryo ko gutanga imvo z'ukwizera kwiwe imbere y'abanyacubahiro b'i Kayisariya, n'imbere y'Umwami Agiripa II, uwa nyuma mu Baherode. «Hashize imisi, umwami Agiripa na Berenike bashika i Kayisariya, baja kuramutsa Fesito. Bamazeyo imisi myinshi, Fesito ashira imbere y'umwami ivya Paulo, ati, Hari umuntu Feliki yasize ari imbohe: aho nari i Yerusalemu abaherezi bakuru n'abakuru b'Abayuda bambariye ivyiwe, basaba ko ndamucira urubanza.» Aherako avuga
[226] ivyatumye iyo mbohe isaba kwitwara kuri Kayisari, avuga ivyo urubanza rwa Paulo imbere yiwe, maze avuga ko Abayuda batari bareze Paulo ibirego nk'uko bari bavyifuje, kiretse «ibihari bimwe bimwe . . . vyo mw'idini yabo, n'ivyo umuntu yitwa Yesu, yapfuye, uwo Paulo yavuga ashimitse ko ari muzima.»

Ubwo Fesito yashikiriza iyo nkuru, Agiripa biramuryohera, maze avuga, ati «Nanje nagomba kwumva uwo muntu.» Nk'uko yavyifuje, bategura ikoraniro bukeye bw'aho. «Bukeye bw'aho, Agiripa na Berenike bazanana icubahiro cinshi, binjirana mw'ikombe n'abakuru b'intwazangabo z'abasoda n'abahambaye bo muri ico gisagara; maze Fesito avuga ko bazana Paulo.» Ku bwo icubahiro c'abashitsi biwe, Fesito yashaka ko uwo musi uba umusi w'akaroruhore. Amakanzu y'igiciro y'ico cegera ca Kayisari n'abatumire biwe, inkota z'abasoda, n'ugukayangana kw'ibirwanisho vy'intwazangabo ziwe, vyongereje ugukayangana kw'uwo musi. Nuko Paulo, akiboshe amaboko, ahagarara imbere y'ikoraniro. Mbega itandukaniro ryari aho! Agiripa na Berenike bafise ubushobozi n'igiti, kandi ku bwo ivyo bubahwa

n'isi. Ariko ntibari bafise ibiranga ingeso Imana ishima. Bahonyanga ivyagezwe vyayo, barononekaye mu mutima no mu buzima. Inyifato yabo yasesema ijuru. Iyo mbohe y'umutama, ibohewe ku basoda bamurinze, nta na kimwe yari ifise cotuma isi imuha icubahiro. Ariko uwo muntu, asa n'uko atagira abagenzi canke ubutunzi canke igiti, kandi aboshwe ku bwo kwizera Umwana w'Imana, ijuru ryose ryari rimwitayeho. Abamarayika ni bo bamuzigama. Iyo ubwiza bw'umwe muri izo ntumwa zikayangana aseruka, ubwiza n'ubwibone bw'ubwami vyari guca bikabirana; umwami n'abateramyi bari kwikubita hasi, nka ba barinzi b'Abaroma ku mva ya Kristo.

Fesito ubwiwe ni we yashikirije Paulo imbere y'iryo koraniro avuga, ati: «Mwami Agiripa, namwe mwese abo turi kumwe hano, murabona uyu, uwo ishengero ry'Abayuda bose bansabira i Yerusalemu bo n'ino, basemerera ngo ntakwiye kubaho. Ariko nsanga ntiyakoze igikwiye kumwicisha, kandi ubwiwe agomvye kwitwara kuri Augusito, mpitamwo kumumurungikira. None mbuze ijambo rimenyekanisha ivyiwe ryo kwandikira umwami wanje, ni co gitumye ndamuzana imbere yanyu, kandi cane-cane imbere yawe, mwami Agiripa, kugira ngo nitwamara kumusiguza, mbone ico kwandika. Kuko ngira ngo ni ico ubwenge buke kurungika imbohe, sinerekane ibirego vyayo.»Umwami Agiripa rero yemerera Paulo kwiregura. Iyo ntumwa ntiyakanzwe n'ibitako canke ivyubahiro vy'iryo koraniro; kuko yari azi ko ubutunzi bw'isi n'ivyubahiro bifise agaciro gato. Ibikayangana n'ubushobozi ntivyashobora na gato gutera ubwoba ubushizi bw'amanga bwiwe canke ngo bimuteshe umutwe. Avuga, ati «Numva nezerewe ko ari wewe ngira niregeko ibi bintu vyose uyu musi: kandi cane-cane ko uzi imigenzo n'impari [227]
vyo mu Bayuda vyose: ni co gitumye nkwinginga ngo wihangane, unyumvirize.»

Paulo aherako abiganira ingene yahindutse yari intagondwa itemera Yesu Umunyanazareti nk'Umucunguzi w'abari mw'isi. Yabiganiye ingene kubonekerwa kuvuye mw'ijuru kwamuteye ubwoba bw'agahomerabunwa, ariko mu nyuma bukamubera isoko y'uguhozwa kunini-ihishurirwa ry'ubwiza bw'Imana, bwarimwo uwicaye ku ntebe y'ubwami, umwe yahoze akengera kandi yanka, akarondera no kuzimanganya abigishwa biwe. Uhereye ico gihe Paulo yari yabaye umuntu mwiza, umwizera akomeye kandi ata-

gira ubudyadya wa Yesu, yagizwe atyo n'ubuntu buhingura. Paulo yerekanye neza imbere ya Agiripa n'ubushobozi ibintu bihambaye vyaranze ubuzima bwa Kristo kw'isi. Yashinze intahe ko Mesiya yavuzwe n'abavugishwa n'Imana yamaze kuboneka muri Yesu Umunyanazareti. Yerekanye ingene Ivyanditswe vyo mw'isezerano rya kera vyari vyemanze ko Mesiya azoza nk'umuntu asa n'abantu, n'ingene mu buzima bwa Yesu hasohoye ido n'ido ivyo Mose n'abavugishwa n'Imana banditse. Kugira ngo acungure ab'isi bazimiye, uwo Mwana w'Imana yategerezwa kubabarizwa ku musaraba, agashinyagurirwa, kandi ko yari yaduze mw'ijuru yatsinze urupfu na kuzimu.

Kubera iki, nk'uko Paulo yavuze, vyasa n'uko bigoye kwemera ko Yesu yozuka mu bapfuye? Ni ukubera ko kera vyasa kuri we nk'uko bidashoboka, ariko noneho yari gushobora guhakana ate ivyo we nawe yiboneye kandi yumvise? Kw'irembo ry'i Damasiko yari yitegereje neza Kristo yabambwe kandi akazuka, wa wundi yagendagenda mu mayira y'i Yerusalemu, yapfuye i Kaluvari, yatsinze urupfu, kandi akaduga mw'ijuru. Nk'uko koko Kefa, Yakobo, Yohana, canke abandi bigishwa bari bamubonye, nawe nyene yari yamubonye kandi avugana na We. Iryo jwi ryari ryamutegetse kwamamaza ubutumwa bwiza bw'Umukiza yazutse, none yashobora ate kugambarara? I Damasiko, i Yerusalemu, i Yudaya hose, no mu turere twa kure, yari yashingiye intahe Yesu Uwabambwe, yereka abantu b'ubwoko bwose «ko bahamagarirwa kwihana bagahindukirira Imana, kandi bagakora ibikorwa bikwiranye n'ukwihana.

Iyo ntumwa ivuga iti «Ni co catumye Abayuda bamfatira mu rusengero, bakageza kunyica. None nabonye gutabarwa kwavuye ku Mana, ndacahagaze kugeza n'ubu, nshingira intahe aboroshe n'abahambaye, nta kindi mvuga atari ivyo abavugishwa n'Imana na Mose bavuzeko bizoba: yuko Kristo atazobura kubabazwa, ko ari we azobanza kuzuka mu bapfuye, no kubwira ubwoko bwacu n'abanyamahanga ubutumwa bw'umuco.»Abakoranye bose bari bumvirije ivyabaye kuri Paulo atawukoma akagohe. Iyo ntumwa yari yibanze ku kintu ikunda kuruta vyose. Nta n'umwe yamwumvirije
[228] yashobora gukekeranya ko atari ukuri. Ariko ubwo yari akibandanya, amajambo yiwe y'ubuhinga yemeza, yahagaritswe na Fesito yasemereye ati, «Erega Paulo urasaze; ubwenge bwawe bwunshi buragusarishije.» Iyo ntumwa isubiza iti, «Sinsaze, Fesito umwubahwa,

ariko mvuga amajambo y'ukuri kandi aroranye. Umwami arazi ivyo neza, kandi ndamubarira nshize amanga; kuko nzi yuko ata na kimwe muri ivyo ahishijwe, kuko ivyo bitakorewe mu mfuruka.» Nuko ahindukirira Agiripa, amubaza imbonankubone, ati «Mwami Agiripa, uremeye ivyo abavugishwa n'Imana? Ndazi yuko uvyemeye.»

Agiripa umutama uramwanka, yibagira abanyacubahiro bamukikuje, n'igihagararo ciwe. Abona gusa ukuri yari yumvise, abona gusa imbohe yicishije bugufi ihagaze imbere yiwe nk'icariho c'Imana, ijambo riramwiyaka, ati «Habuze gato gusa ngo umpindure Umukristo» Iyo ntumwa yishura yemanga iti, «Ndasaba Imana ari bike ari vyinshi, yuko atoba wewe wenyene, ariko n'abanyumva uyu musi mwese, ko vyobahindura nkanje,» yongerako yerekana imvuto ku maboko ati «ukuyemwo iyi minyororo.»

Fesito, Agiripa na Berenike mu vy'ukuri bari bakwiye kwambikwa izo mvuto zaboshe iyo ntumwa. Abo bose bari bakoze ivyaha vy'agahomerabunwa. Abo banyakibi bari bahawe uwo musi agakiza mw'izina rya Kristo. Umwe, n'imiburiburi yahatswe kwakira ubuntu n'ikigongwe. Ariko Agiripa yateye umugongo ico kigongwe ahawe, yanka kwakira umusaraba w'Umucunguzi yabambwe. Umwami yari yazanywe no gusoma urusaku yari yaronse ico yarondera, maze ahaguruka mu ntebe, yerekana ko umubonano uheze. Ubwo abo bantu bari bakoranye bataha, bagiye bongorerana bavuga bati, «Ntaco uyu muntu yakoze gikwiye kumwicisha canke kumubohesha.» Naho Agiripa yari Umuyuda, ntiyashigikiye amacakubiri y'idini n'ivyiyumviro bidafashe vy'Abafarisayo. Abwira Fesito, ati «Uyu muntu aba arekuwe, iyo ataba yari agomvye kuzokwitwara kuri Kayisari.» Ariko noneho urubanza rwari rwungururijwe kuri sentare yo hejuru, kandi ivyo vyari birengeye urwego rwa Fesito canke Agiripa.

## Ikigabane ca 42: Ubwato Busabira Mu Kiyaga

*Iki Kigabaue Gishimikiye Ivyakozive 27; 28:1-10.*

Vyabaye kera Paulo afata urugendo aja i Roma. «Bamaze gushinga,» ni ko Luka yandika avuga, «ngo tujabuke tuje muri Itahya, Paulo n'izindi mbohe babaha intwazangabo itegeka abasoda ijana yitwa Yuhyo, wo mu ngabo za Augusito. Batambukira mu bwato bwavuye muri Aduramutiyo, bugira bugende
[229] bujabukiranya ahantu ho muri Asiya haherereye ku kiyaga, tuvudukayo turi kumwe na Arisitariko Umunyamakedoniya w'i Tesalonike.» Mu kinjana ca mbere c'Ibihe vya Kristo, urugendo rwo mu kiyaga rwarimwo imiruho n'akaga kadasanzwe. Abasozi bagenda bisunga izuba n'inyenyeri; kandi igihe bitabonetse mu kirere, hakaba n'ibimenyetso vy'imikuba, bene ubwato batinya ko bayogerera mu kiyaga. Mu gihe runaka c'umwaka, urugendo rwo mu mazi rwasa n'urudashoboka. Intumwa Paulo rero yasabwa kwihanganira ivyari bimurindiriye nk'imbohe muri urwo rugendo rurerure kandi ruruhije rwo kuja muri Itahya. Ikintu kimwe catumye yoroherwa- yemerewe kubana na Luka na Arisitariko. Mw'ikete yandikiye Abo i Kolosayi, mu nyuma y'aho yavuze kuri Arisitariko nk' «uwo dusangiye umunyororo» (Ab'i Kolosayi 4:10); ariko kuba Arisitariko yasangiye imvuto na Paulo bari babiteguye batyo, ngo amufashe mu mibabaro yiwe. Urugendo rwatanguye neza. Bukeye bw'aho bafata i Sidoni. Yuhyo intwazangabo itegeka abasoda ijana, «agirira Paulo neza,» kandi amenye ko hari Abakristo muri ako karere, «amukundira kugendera abagenzi ngo bamuzimane.»Urwo ruhusha iyo ntumwa yararushimye cane kuko amagara yari yamukitse.

Bavuye i Sidoni, ubwato bwahuye n'umuyaga unyuranye n'iyo baja; maze ku bwo guta inzira iramvuye, bituma ubwato bugenda buhoro buhoro. I Mura mu ntara y'i Lukiya, wa mutware w'abasoda ijana asanga ubwato bunini bw'i Alekisanderiya, buja muri Itahya, maze aca yurizamwo abanyororo biwe. Ariko umuyaga wari ukinyuranye n'inzira y'ubwato, maze ubwato bugira ingorane zo kwun-

guruza. Luka yandika, ati «Tumaze imisi myinshi tugenda buhoro, dushika hafi y'i Kinido bitugoye cane, maze umuyaga utubujije duca musi y'i Kirete, imbere y'i Salumone, ngo tuhikinge umuyaga; tuhashikira bitugoye cane, dushika ahantu hitwa Vyambuvyiza.»

Aho i Vyambuvyiza bategetswe kuhaguma gato, barindiriye ko ikirere cotekana. Igihe c'imbeho cariko kiregereza vuba; «kujabuka kwabaye irinde;» kandi bene ubwato bataye ivyizigiro vyo gushika iyo baja igihe c'imbeho kitarashika kuko kugendera mu kiyaga vyari bigiye guhagarikwa muri uwo mwaka. Icashobora gukorwa gusa, kwari kuguma muri Vyambuvyiza, canke kuronka ahantu ho kurindirira ngo igihe c'imbeho kirangire. Iki kibazo baragihaririyeko cane, hanyuma vyatevye wa mutware w'abasoda ijana ashira umwizero wiwe muri Paulo kuko yamwubaha co kimwe n'abari mu bwato n'abasoda. Paulo yishura adakekeranya abahanura ko boguma aho bari. Avuga, ati «mbonye yuko uru rugendo rugira rubemwo ivyago n'ubuhombe bwinshi, si ivyo ubwato n'ibirimwo gusa, ariko n'amagara yacu na yo.» Ariko «uwutegeka ubwato na nyene bwo,» na benshi mu ngenzi n'abayobora ubwato, ntibemera iyo mpanuro. Kubera icambu bari bahagazemwo «kitari ciza co kwugamamwo kuhamara urushana, abenshi babagira [230] inama yo kuvayo, ngo bishobotse bashike i Foyinike, kuba ari ho bamara urushana; hari icambu c'i Kirete hagati y'i bumanuko n'i burengerazuba, no hagati y'i buraruko n'i burengerazuba.»

Uwo mukuru w'abasoda ijana ahitamwo gukurikira inama ya benshi. Nuko «umuyaga uturutse i bumanuko uhuhereye buhoro,» bava mu Vyambuvyiza, bibwira ko baronse ico bagomba. «Ariko igihe kitari kinini gishize . . . hatera umuyaga w'igihuhusi;» «ubwato bumaze gukubegwa, butagishobora gutumbera umuyaga.»Ubwato butwarwa n'imikuba, bwegera akazinga kitwa Kilawudiya, maze igihe bari bahikinze umuyaga, babona kuboha akato k'inyuma bibagoye cane; ubwo bwato bw'integakiba, inzira yari isigaye yo gukiriramwo igihe ubwato bwari kwibira, bwari bubohewe inyuma, kandi bwashobora gucika ubunywenywe igihe ico ari co cose. Igikorwa cabo ca mbere cabaye ico gukwegera ako kato mu bwo barimwo. Gutyo rero bari bategekanije gukomeza ubwato no kubutegura ngo burinde umuyaga. Ubwo buhungiro budafashe baronkeye kuri ako kazinga ntibwabakingiye igihe gi-

hagije, kuko bidatevye baciye bongera guhangarana n'umuyaga w'akataraboneka.

Ijoro ryose umuyaga warakubise, maze ubwato naho bari bagerageje kubukingira burameneka. «Bukeye bw'aho bata imitwaro rnu kiyaga ngo baremurure ubwato.» Bwongera kwira, ariko umuyaga ntiwagabanuka. Ubwato bwari bwasinzikajwe n'umuyaga, bumaze gutabagurika, bubazungagiza hirya no hino kubera ubushangashigwe bw'umuyaga. Igihe cose vyasa n'uko izo mbaho zitera akaruru zigiye gutandukana uko ubwato bwahungabana ku bwo igihuhusi. Imigaga yiyongereye vuba vuba, maze ingenzi na bene ubwato bakomeza guseha amazi bayavana mu bwato. Nta n'umwe mu bari mu bwato yahumetse. «Ku musi ugira gatatu,» ni ko Luka yanditse «dutesha amaboko yacu ibikoreshwa mu bwato. Kandi izuba n'inyenyeri bimaze imisi myinshi bitaboneka, turi mu gihuhuta cinshi gityo, twihebura rwose ko atawuzokira.»Mu misi cumi n'ine bazungagizwa musi y'ijuru ritagira izuba canke inyenyeri. Ya ntumwa naho yari ibabaye ku mubiri, yari ifise amajambo y'ivyizigiro mu gihe c'akaga gakomeye nk'ako, ikiganza co gufasha mu ngorane iyo ari yo yose. Yafashe ku bwo kwizera ukuboko kw'Ububasha butagira iherezo, kandi umutima wiwe ntiwaviririye Imana. Nti yatinya ku bwo ubuzima bwiwe; yari azi ko Imana izomuzigama ngo ashingire intahe y'ukuri kwa Kristo i Roma. Ariko umutima wiwe waterwa akagongwe n'abantu bari kumwe, abanyavyaha, bataye akaranga, batiteguriye gupfa. Ubwo yinginga Imana ngo izigame ubugingo bwabo, yahishuriwe ko isengesho ryiwe ryakiriwe. Abonye igihuhusi kigabanutse, Paulo aboneraho
[231] akaryo ko guhagarara hagati muri bo, ashira ijwi hejuru, ati «Yemwe bagabo, mwari mukwiye kunyumvira, ntimuve i Kirete, ngo mugire ibi vyago n'ubuhombe. Kandi none ndabaremesha, nimuhumure: kuko muri mwebwe hatazopfa n'umwe, atari ubwato. Kuko muri iri joro umumarayika w'Imana, ndi uwayo, kandi ni yo nkorera, yahagaze i ruhande yanje, arambwira, ati Nta co utinya, Paulo; ukwiye guhagarara imbere ya Kayisari, kandi ehe Imana ikwemereye n'abo mugendanye bose. Nuko nimuhumure, yemwe bagabo: kuko nizeye Imana, yuko bizoba nk'uko nabariwe. Ariko turashobora kunanirwa iki ikizinga .»

Bumvise aya majambo, basubiza umutima mu nda. Bari mu bwato n'ababuyoboye barikangura. Ariko hari hakiri vyinshi vyo

gukorwa, kandi inkomezi zabo zose bategerezwa kuzikoresha ngo birinde akaga. Ijoro ry'icumi na kane rishitse bakubegwa irya n'ino, ni ho nko «mu gicugu hagati» abagendesha ubwato bakeka ko hari igihugu begereye; bagera uburebure bw'amazi yo hasi, babona ingero mirongo ibiri: hashize umwanya muto bongera kugera, babona ingero cumi na zitanu. Luka yandika avuga ati, «kandi kuko twatinya gusukwa ahantu h'amabuye duterera mu mazi ivyuma bine vyo kuzirika ubwato tubicishije mu mutwe w'inyuma, twifuza ko buca.»Bukeye twarashobora kubona inkombe z'ikiyaga zahomaguwe n'igihuhusi ariko ntitwashobora kubona igihugu tugomba twinjiremwo. Abagendesha ubwato basa n'uko bihebuye, «barondeye ingene babuhungamwo,» bigirisha nk'abagomba «kuzirikisha ivyuma umutwe w'imbere,» bari bamaze kwururukiriza ka kato mu kiyaga, Paulo, abonye intumbero yabo, ni ko kubwira ya ntwazangabo itegeka abasoda ijana hamwe n'abasoda, ati «Aba ni bataguma mu bwato ntimushobora gukira.» Maze abasoda baca «imigozi ifashe akato, ngo bakareke gakorokere» mu kiyaga.

Igihe gikomeye cari kikiri imbere. Ya ntumwa yongera kandi kubaremesha, yinginga bose ngo bafungure, abagendesha ubwato hamwe n'ababurimwo, ivuga iti «Uyu musi ni uwugira icumi na kane mukirorereye mutarya, ataco mutamira. Nuko ndabinginze, nimurabe utwo murya: kuko ari vyo vyobakiza, kandi ntahazohara agashatsi ku mitwe yanyu.» «Amaze kuvuga ivyo, afata umutsima, ashimira Imana imbere yabo bose, arawumanyagura, atangura kurya.» Nuko abo banfu basaga amajana abiri na mirongo indwi na batanu bari barushe kandi bari gutakaza ivyizigiro vyose iyo ataba Paulo, baherako na bo bararya. «Bamaze guhaga, baremurura ubwato, bata ingano mu kiyaga.» Ijoro ryari ryakeye neza, ariko ntibamenya ico gihugu. Ariko «babonye ikigobe kirimwo umusenyi, baja inama yuko boshobora gushikanaho ubwato. Bazitura imigozi ifashe ivyuma biziritse ubwato,babirekera i bwina; bariko barabikora, batenzura imigozi yari igumije ingafe zihindukiza ubwato, baduza igihuzu c'imbere kibugendesha ngo gihehwe n'umuyaga, batumbereza ku musenyi. Ariko abashitse mw'ihuriro ry'amazi, [232]
basekura ubwato ku gataka, maze umutwe wabwo w'imbere winjiramwo, urahamangira, uwo inyuma na wo utangura kumenagurwa n'inkomezi z'imipfunda.»

Paulo n'abandi banyororo ubu naho batinya ikiruta isanganya ry'ubwato. Abasoda babonye ko nibegereza kw'isi bidashoboka ko borinda abanyororo bose bajejwe. Umuntu wese aja gukora ivyo ashoboye ngo anyage amagara. Ariko igihe umwe wenyene yobacika, ababacunze boca bicwa. Itegeko ry'Abaroma ni ko ryari rimeze, kandi uko ni ko vyari kugenda. Yuhyo ya ntwazangabo y'abasoda ijana yari azi ko Paulo yagize uruhara mu kurokora ubuzima bw'abari mu bwato, kandi ikigeretseko, yemera ko Umwami Imana yari kumwe nawe, atinya kumugirira nabi. Nuko «ategeka ko abazi kwoga bokwisuka mu mazi, kugira ngo babanze gushika ku nkombe: abandi na bo, bamwe bagende ku mbaho, abandi ku bisigazwa vy'ubwato. Nuko bagenza batyo, bashika ku nkombe bose, barakira.» Bahamagaye abantu basanga nta n'umwe abuze.

Abakize isanganya ry'ubwato bakirwa neza n'abanyamahanga badebagura b'I Mehta. Luka yandika avuga ati, «baducanira umuriro, ku bwo imvura n'imbeho vyariho.» Paulo yari umwe mu bafasha abandi n'ukubatera intege. Amaze gusenya «umuganda w'inkwi,» «arazikomanya,» inzoka «iva mu muriro, imwizingira ku kuboko iramukomora.»Abari aho babibonye bicwa n'ubwoba; barabiye ku minyororo bamenya ko Paulo yari imbohe, maze bavugana bati, «nta nkeka uyu muntu ntabuze kuba umwicanyi, kandi naho yakize ikiyaga, Iyidaca urwa nkunzi ntimukimdiye ko abaho.» Ariko Paulo we, akunkumurira ico gikoko mu muriro, ntiyagira ico aba. Kubera bari bazi ko iyo nzoka ifise ubumara, ba bandi barereka ko avyimba, canke ko agwa bukumbi. «Ariko bamara umwanya munini babirereretse, babonye ata co abaye, barahindura, bati ni Imana.»

Mu mezi atatu bamaze i Melita, Paulo na bagenziwe baboneyeho akaryo ko kuvuga ubutumwa bwiza. Mu buryo butangaje Imana yarabakoresheje. Ku bwa Paulo, bari mu bwato bose bafashwe neza; ivyo bashaka vyose barabironka, kandi bavuye i Mehta bahawe ivyo bakeneye vyose mu rugendo. Bimwe mu bikuru vyabashikiye Luka abivuga mu ncamake ati:«Hafi y'aho hantu hari amatongo, y'umukuru w'ico kizinga, yitwa Pubihyo, aratwakira, atuzimana neza imisi itatu. Se wa Pubiliyo yari arwaye inyonko kandi agacibwamwo amaraso, maze Paulo yinjira i we, arasenga, amurambikako ibiganza, aramukiza. Ivyo bibaye, abandi bari n'indwara bo muri ico kizinga baraza, arazibakiza. Baduha icubahiro mu buryo bwinshi; maze mu gihe co kujabuka kwacu bashira mu bwato ivyo dukeneye.»

# Ikigabane ca 43: I Roma [233]

*Iki kigabane Gihimikiye ku Vyakozioe 28:11-31 n'Ikete kuri Filemoni*

Ingendo zo kumazi zimaze kwugururwa, ya ntwazangabo y'abasoda ijana hamwe n'abafungwa batangura urugendo bagana i Roma. Izo ngenzi zinjira mu bwato bwavuye muri Alekisandiriya, bwitwa «Kasitori na Poluki» bwari bumaze iyo misi y'urushana ku kizinga ca Melita bugana i Burengerazuba. Naho bwatevye kubera umuyaga uhushanye n'intumbero v'ubwato, urugendo rwagenze neza, maze ubwato buhagarara ku kivuko giteye igomwe ca Puteyoli, ku nkengera y'Ubutaliyano. Muri ico kibanza hari Abakristo bakeyi, nuko binginga ya ntumwa ngo bamarane na bo imisi indwi, ya ntwazangabo y'abasoda ijana irabibemerera. Kuva baronse ikete Paulo yandikiye Abaroma, Abakristo bo mu Butaliyano bari bifuje cane ko iyo ntumwa ibagendera. Ntibashobora kwiyumvira ko bazomubona ari imbohe, ariko ububabare bwiwe bwabateye kumukunda kuruta. Kubera hagati ya Puteyoli na Roma hari ibirometero amajana abiri, Kandi ikivuko kikaba caguma gifise imigenderanire n'umugwa mukuru, Abakristo b'i Roma baramenye ko Paulo yegereje kubashikira, maze bamwe muri bo baherako baja kumutegera no kumuha ikaze.

Ku musi ugira umunani kuva ubwato bushitse, ya ntwazangabo y'abasoda ijana hamwe n'abafungwa bashika i Roma. Yuliya agirira Paulo ivyiza vyose ashoboye; ariko ntiyashobora kugira ico ahinduye kuri iyo mbohe canke ngo ayibohore umunyororo wari uyiboheye ku musoda amurinda. Paulo yashitse ku mugwa mukuru w'isi aho bari bamwiteze kuva kera aremerewe cane mu mutima. Ese ingene yari atandukanye n abo yari yiteze kubona! Vyashoboka bite ko avuga ubutumwa ari imbohe kandi ashinyagurirwa? Ivyizigiro vyiwe vyo kuzana benshi ku kuri i Roma, vyasa n'umugani. Vyatevye izo ngenzi zishika ahitwa Akaguriro ka Apiyo, ibirometero mirongo itandatu ngo ushike i Roma. Ubwo banyura hagati y'isinzi

ry'abantu buzuye muri ico kibanza c amayirabiri, uwo mutama w'imvi, abohewe hamwe n'inkozi z'ikibi rurangiranwa, yakirwa n'amenyo y'abatwenzi n'agashinyaguro.

Niho humvikana akamo k'umunezero, maze abantu benshi bisaturira inzira hagati y'iryo sinzi ry'abantu, maze bagwa kw'izosi ry'iyo mbohe, bamuhobera barira n'umunezero, nk'umwana yakirana igishika umuvyeyi wiwe baari baratandukanye kuva kera. Ivyo vyarakomeje ubwo amaso menshi yamurabana urukundo, benshi bakabona muri iyo mbohe wa wundi Korinto, i Filipi, muri Efeso, yari yababwiye amajambo y ubugingo. Ubwo abo bigishwa bagundanira kuri se wabo yabavyaje ubutumwa, abantu bose basabwa guhagarara. Abasoda nta mwanya bagomba gutakaza, ariko kandi ntibashobora kubuza iryo huriro ry akanyamuneza; kuko na bo
[234] nyene bari bize kwubaha n'ugukunda iyo imbohe yabo. Muri ayo maso arushe n'umubabaro, abigishwa babonye ubwiza bwa Kristo buhakayanganira. Bemeza Paulo ko batamwibagiye canke ngo bahengeshanye kumukunda; bamwemeza ko ari we bakesha ivyizigiro vy'umunezero bafise kandi bibaha amahoro imbere y'Imana. Ku bwo urukundo bamufitiye, bari kumucisha mu gisagara bamuhetse iyo baronka ayo mahirwe.

Ni bake batahura ubusobanuro bw'aya majambo ya Luka, ko igihe Paulo yabona bene Data «ashima Imana, kandi ararema.» Hagati y' iryo koraniro ry'abizera bamwakiranye amarira, batakorwa n'isoni ku bwo imvuto ziwe, iyo ntumwa yaraturitse ishima Imana. Igicu c'akababaro cari mu mutima wiwe gica kirayonga. Ubuzima Rukristo bwiwe bwari bwabaye urukurikirane rw'amageragezwa, imibabaro, n'agahinda, ariko muri ako kanya, yumvise aronse inshumbushanyo. Yabandanije urugendo rwiwe aremye kandi anezerewe. Ntiyisiba ku bwo ako kahise, canke ngo atinye kazoza. Yari azi ko imvuto n'imibabaro bimurindiriye; ariko yari azi kandi ko ivyo vyashitse kugira ngo akize imitima imvuto zirushirije kuba mbi, maze anezerezwa no kubabazwa ku bwa Kristo.

I Roma, Yuhya ashikiriza imbohe ziwe umukuru w'abarinzi b'umwami. Ivyiza yavuze kuri Paulo, bifatanije n'ikete rya Fesito, vyatumye umukuru w'ingabo yakira neza Paulo, kandi aho gutabwa mw'ibohero, ahabwa uburenganzira bwo kuba mu nzu yisangije. Naho yaguma aboheye ku musoda, yari afise umwidegemvyo wo kwakira abagenzi no gukora ngo yagure igikorwa ca Kristo.Benshi

mu Bayuda bari birukanywe i Roma mu misi yashize, bari bemerewe kugaruka, ku buryo benshi muri bo bashobora kuba ariho bari. Paulo yafashe ingingo yo kubabwira ivyiwe n'igikorwa ciwe, abansi biwe batararonka akaryo ko kumurega kuri bo. Imisi itatu ishize bashitse i Roma, ahamagara abakuru bo muri bo abakoraniriza hamwe, maze mu majambo yoroshe kandi atarya umunwa ababwira icatumye aza i Roma nk'imbohe. Arababarira, ati «Bagabo bene Data, naho ntagize ikibi nakoze ku bwoko bwacu canke ku migenzo ya ba sogokuruza, bampaye Abaroma ndi imbohe, bamvanye i Yerusalemu. Naho bamaze kuncunaguza, bashaka kundekura, kuko ata nyanduruko yambonetseko yo kunyica. Ariko Abayuda batagaye, numva nkwiye kwitwara kuri Kayisari; ariko si uko mfise ico ndega ubwoko bwacu. Ivyo ni vyo nabatumiyeko ngo tuvugane tubonana: kuko ivyo Abisirayeh bizigira kuzobona ari vyo vyatumye mboheshwa uyu munyororo.» Ntiyacishije mu kanwa ibibi Abayuda bamukoreye, canke imigambi yabo yo kumuryamira ngo bamwice. Amajambo yiwe yari amajambo yitondewe kandi y'ubugwaneza. Ntiyarondera ko abantu bamukunda canke ngo bamwiyumvemwo, ahubwo yashaka kuhagararira ukuri no kudakoza isoni ubutumwa bwiza.

Nabo bamwishura ko ata makete baronse avuye i Yudaya amurega, karidi ko bene Data baje ata wababariye inkuru mbi yiwe, canke ngo amuvuge nabi. Bamweretse kandi ko bifuza cane kwumviriza imvo ziwe zo kwizera kristo. Bavuze bati, «Kuko ku vyo ico gice, tuzi ko abantu benshi bakivuga nabi.»Kubera bavyifuje, Paulo abasaba gushinga umusi kugira ngo azobabwire ukuri kw'ubutumwa bwiza. Ku musi basezeranye baza ari benshi, «arabibasobanurira, ashingira intahe ivyo ubwami bw'Imana, abemeza ivya Yesu, abikuye mu vyagezwe vya Mose, no mu vyo abavugishwa n'Imana. Ahera mu gitondo ashitsa ku mugoroba.» Yarababariye ivyamubayeko, abereka ivyemezo mw'Isezerano rya Kera mu majambo yoroshe, adaca i ruhande kandi n'ubushobozi. [235]

Iyo ntumwa yaberetse ko idini atari imihango n'imigenzo, ivyo abantu bemera badatohoje canke ivyiyumviro vy'abantu. Iyaba vyashoboka, umuntu w'umubiri yobitahuye mu bushakashatsi bwiwe, nk'uko atahura ibintu vy'isi. Paulo yigishije ko idini ari inkomezi zigaragara, zikiza, ibintu biva ku Mana, imigenderanire y'umuntu n'ububasha bw'Imana buhindura umutima. Yaberetse

ingene Mose yari yeretse Isirayeli Kristo nk'Umuvugishwa n'Imana basabwa kwumvira; ingene abavugishwa n'Imana bose bamwerekanye nk' umuti ruhasha w'Imana ku caha, Uwutakoze icaha yategerezwa kwiremeka ivyaha n'igihano cavyo. Ntiyabonye amakosa mu mihango n'imigenzo yabo, ariko yaberetse ko naho bihambirira kuri iyo mihango, bariko baratera umugongo Uwo iyo mihango yose yagereranya. Paulo yemanze ko atarahindukirira Imana yamenye Kristo, batabonanye amaso mu yandi, ahubwo akurikije ivyiyumviro abandi bose bari bafise, yishimira kamere n'igikorwa ca Mesiya azoza. Yari yihakanye Yesu Umunyanazareti ngo ni umwangushi kubera atari ahwanye n'ivyo vyiyumviro. Ariko ubu noneho, uburyo abona Kristo n'igikorwa camuzanye cari kirushirije kuba ica Mpwemu kandi gihambaye kuruta, kubera yari yarahindukiriye Imana. Paulo yababariye ko ataberetse Kristo mu buryo bw'umubiri. Herode yari yabonye Kristo ari mu mubiri w'umuntu; Ana yari yaramubonye; Pirato n'abaherezi n'abakuru bari baramubonye; abasoda b'Abaroma bari baramubonye. Ariko ntibari bamubonye n'amaso yo kwizera; ntibari bamubonye nk'Umukiza w'icubahiro. -Kumenya Kristo ku bwo kwizera, kumumenya mu buryo bw'impwemu, vyategerezwa kwifuzwa kuruta kumubona igihe yaseruka kw'isi. Ubumwe na Kristo Paulo yari afise ubu bwari bukomeye kuruta, ari ubwo igihe kirekire kuruta kubana na we kw'isi kandi ari umuntu.

Igihe Paulo yavuga ivyo azi, ashingira intahe ivyo yabonye kuri Yesu Umunyanazareti nk'ivyizigiro vya Isirayeli, abarondera ukuri ata buryarya baremeye. Kuri bamwe, amajambo yiwe yiyanditse mu mitima yabo ubutakihava. Ariko abandi barikomantaje [236] imitima banka kwakira ivyemezo vy'Ivyanditswe Vyera, naho vyatangwa n'umuntu yamurikiwe na Mpwemu Yera mu buryo budasanzwe. Ntibashobora kuvuguruza ivyiyumviro vyiwe, ariko ntibemeye indunduro yavyo. Amezi menshi yaraheze kuva Paulo ashitse i Roma, imbere y'uko Abayuda b'i Yerusalemu bishikira ngo barege iyo mbohe. Bari bateshejwe incuro nyinshi gushitsa imigambi yabo; ubu noneho ko Paulo agira acirwe urubanza na sentare ya nyuma y'ubwami bw'Abaroma, ntibifuza kwongera gutaha zirayoye. Lusiya, Feliki, Fesito, na Agiripa bose bari batangaje ko ata caha kimwagira. Abansi biwe bari basigaje ikizigizigi ku kwikundwakaza ku mwami. Gutevya urubanza vyabafasha kuronka

umwanya uhagije wo kuronka ivyo barementanya, niko kurindira imbere y'uko barega iyo ntumwa imbonankubone. Mu nteguro zitangaje z'Imana, gutevya urubanza vyafashije mu kuvuga ubutumwa. Kubera abari barinze Paulo bamwiyumvamwo, yemerewe kuba mu nzu ibereye, aho ashobora guhura n'abagenzi biwe ata nkomanzi, n'ukubwira ukuri buri musi abaza kumwumviriza. Gutyo rero, mu myaka ibiri yose, yabandanije ibikorwa vyiwe, «akabahanura mu vyo ubwami bw'Imana, akigisha ivyo Umwami Yesu Kristo, ashize amanga rwose, ata wumubuza.»

Muri ico gihe, amashengero yari yashinze mu turere twinshi ntiyayibagiye. Abonye akaga gahanze abakiriye uko kwizera gusha, iyo ntumwa yagerageje uko ishoboye kubafasha mu makete yo kubagabisha n'inyigisho zifadika. Kandi yarungitse intumwa zitanga zo gukorera atari amashengero y'i Roma gusa, ahubwo no mu tundi turere we ubwiwe atari yarashoboye kugendera. Abo bakozi, nk'abungere b'ubwenge, bakomeje igikorwa Paulo yari yatanguje; maze iyo ntumwa, iguma ironka inkuru z'ubuzima bw'ayo mashengero n'akaga kayageramiye, mu kugumya imigenderanire n'abo bakozi, maze ashobora kuyagenzura neza yose. Gutyo rero, naho vyasa n'uko adashobora gukora, Paulo yakoze ibihambaye kuruta iyo aronka umwidegemvyo wo kugendera muri ayo mashengero nk'uko yabikora mu myaka y'imbere. Nk'imbohe y'Umwami, yari afitaniye ubumwe bukomeye na bene Data; kandi amajambo yiwe, yanditswe n'umuntu ari mu mvuto ku bwa Kristo, yatuma abantu bayaha agaciro kuruta igihe yari kumwe na bo. Abizera ntibigeze batahura neza imitwaro Paulo yikorera ku bwa bo, gushika igihe yavanwa hagati yabo. Gushika ubu bari batanze ivyitwazo vyo kudakora ico bajejwe n'ukwikorera imitwaro kubera ko batari bafise ubwenge n'ubushishozi nk'ubwiwe, n'inkomezi ziwe zitangaje; ariko noneho, bari bonyene muri ubwo butashobozi buke bategerezwa kwiga ivyigwa bari barirengagije, baha agaciro amajambo yiwe yo kubagabisha, impanuro ziwe, n'inyigisho ziwe kuruta uko bari bahaye agaciro igikorwa yakoreye muri bo. Kandi kubera bamenye ubushizi bw'amanga bwiwe n'ukwizera kwiwe muri ico gihe [237]
kirekire ari mu mvuto, ivyo vyatumye bahitamwo kuyoboka no kwijukira igikorwa ca Kristo.

Mu bafasha Paulo i Roma harimwo abagendana na we n'abo bahoze bakorana. Luka, «umuganga mukundwa,» yari yamwitayeho

mu rugendo rwiwe aja i Yerusalemu, mu myaka ibiri afungiwe i Kayisariya, n'igihe ca rwa rugendo rw'irinde mu kiyaga aja i Roma, yakomeje kubana na we. Timoteyo na we nyene yaramuremesheje. Tukiko, «mwene Data dukunda, umukozi w'umwizigirwa, umugenzi dukorana mu Mwami wacu,» yagumye i ruhande rwa Paulo ubudahengeshanya. Dema na Mariko na bo nyene bari kuinwe na we. Arisitariko na Epafura bari «abo bisangiye umunyororo.» Ab'i Kolosisayi 4:7-14.

Kuva imyaka ya mbere y'ukwizera kwiwe, ubuzima Rukristo bwa Mariko bwarakomejwe. Ubwo yari yarize neza ubuzima n'urupfu vya Kristo, yatahuye neza igikorwa c'Umukiza, imiruho yiwe n'ingorane yaciyemwo. Ubwo yasoma mu nkovu z'ibiganza vya Kristo no mu birenge vyiwe ikimenyamenya c'igikorwa yakoreye abari mw'isi, n'aho ukwiyanka ku bwo gucungura umuntu kugera, Mariko yari yiyemeje gukurikira Umwami mu nzira y'ukwitanga. Ubu, yifatanije na Paulo nk'imbohe, yatahuye cane kuruta ibindi bihe vyose ko kuronka Kristo biruta inyungu zose, kwari ubuhombe kwunguka isi, ugatakaza ubugingo bwatumye Kristo asesa amaraso ngo aburokore. Imbere y'amageragezwa akomeye n'abarwanizi, Mariko yabandanije kuba umufasha ntahemuka w'iyo ntumwa. Dema, yabanye na we igihe gito, hanyuma aheba igikorwa ca Kristo. Paulo abivuga mu majambo yanditse, «Dema yarantaye, kuko akunze iyi si ya none.» 2 Timoteyo 4:10. Ku bwo inyungu z'isi Dema yahevye ibikomeye kandi bitunganye. Mbega ubuhumyi buri aho! Kuba yaronse gusa ubutunzi bw'isi canke icubahiro, Dema yabaye umukene vy'ukuri, naho we yiyita uwuhambaye; ariko Mariko, yahisemwo kubabara ku bwa Kristo, yari afise ubutunzi bw'ibihe bidashira, ku bwo guharurwa mw'ijuru nka samuragwa w'Imana, nuwuraganwa n'Umwana wayo. Mu bahaye imitima yabo Imana ku bwo ibikorwa vya Paulo i Roma, harimwo Onesimo, umugurano w'umupagani yari yarivye shebuja, Filemoni, Umukristo wo muri Kolosi, yari yatorokeye i Roma. Mu bugwaneza, Paulo yashaka gutabara iyo mpunzi mu bukene n'agahinda kayo ngo maze abonereho kuzana umuco w'ukuri mu mutima wiwe wuzuye umwiza. Onesimo yumvirije amajambo y'ubugingo, yatura ivyaha vyiwe, kandi arahinduka yakira Kristo.

Onesimo yashimishije Paulo ku bwo kwubaha Imana kwiwe, kuba imvugakuri n'uburyo yitayeho Paulo, no ku mwete wiwe mu

kwamamaza ubutumwa bwiza. Paulo yamubonyemwo kamere izotuma aba umufasha nkenerwa mu gikorwa co gutwara ubutumwa, maze amusaba gusubira kwa Filemoni adatevye, ngo amusabe ikigongwe, no kwitegurira kazoza. Paulo yiyemeje kuriha amahera [238] yari yarivye Filemoni. Igihe yitegura kurungikana Tukiko amakete muri Asiya ya Hafi, yamurungikanye na Onesimo. Cari igipimo kitoroshe kuri uyu mugurano, gusubira kwa shebuja yari yarivye; ariko yari yarahindutse koko, ntiyirengagije rero igikorwa kimwega.

Paulo yarungikanye Onesimo ikete yandikiye Filemoni, yanditsemwo mu majambo yiwe asanzwe y'ubugwaneza n'ubwenge, iyo yinginga avugira uwo mugurano yihanye kandi yerekana icifuzo ciwe co kumwikorako ngo amufashe ibikorwa muri kazoza. Iryo kete ritanguza amajambo y'ubugwaneza, y'indamutso ashikiriza Filemoni nk'umugenzi n'uwo bisangiye igikorwa: «Ubuntu bube muri mwebwe n'amahoro biva ku Mana, Data wa twese, no ku Mwami Yesu Kristo. Nshima Imana yanje ubudasiba, nguhoza mu kanwa uko nsenze, kuko numvise urukundo rwawe n'ukwizera Umwami Yesu kwawe, uko wereka abera bose: kugira ngo ugufataniriza mu kwizera kwawe gushobore vyinshi ku bwa kristo, mu kumenyekanisha ivyiza vyose vyo muri twebwe.» Iyo ntumwa yibukije Filemoni ko umugambi wose n'imico myiza yari afise vyavuye ku buntu bwa kristo; ubwo bwonyene ni bwo bwamugize uwutandukanye n'ab'iyi si yamogoreye gukora icaha. Ubwo buntu nyene bwashobora guhindura umwicanyi bukamugira umwana w'Imana n'umukozi ngirakamaro w'ubutumwa bwiza.

Paulo yari guhatira Filemoni gukora igikorwa ciwe nk'Umukristo; ariko yakoresheje imvugo yo kwinginga: «Paulo, umutama, kandi none ndi imbohe ya Kristo Yesu. Ndakwitwayeko ku mwana wanje Onesimo uwo navyariye mu minyororo yanje, atakugirira ikimazi kera, ariko noneho atugirira ikimazi twempi.» Iyo ntumwa yasavye Filemoni, kubera guhinduka kwa Onesimo, kwakira uwo mugurano yihanye nk'umwana wiwe bwite, amwereka urukundo rwotuma ahitamwo kugumana na shebuja wiwe wa kera, «atakiri umugurano wawe, ariko aruta umugurano, ari mwene So, akundwa.»Yamweretse icifuzo ciwe co kumugumya ngo amukorere mu mvuto ziwe nk'uko Filemoni ubwiwe yashobora kubikora, naho atashaka ko amukorera kiretse Filemoni amuhaye uburenganzira ata kugoberwa. Iyo ntumwa yari izi agahahazo abantu bagirira abagurano babo, kandi

yari azi ko Filemoni yari yashavuye kubera inyifato y'umusuku wiwe. Yagerageje kumwandikira mu buryo bwotuma agira inyifato y'urukundo Rukristo. Uguhinduka kwa Onesimo kwari kwamuhinduye umuvukanyi mu kwizera, kandi igihano ico ari co cose uwo Mukristo musha yari guhabwa cari kuba nk'uko ari Paulo agihawe. Paulo yahisemwo kwiremeka umwenda wa Onesimeo, kugira ngo uwakoze icaha aharirirwe, yongere asubire mu ruhongore rw'ivyiza yari yarikuyemwo. Yandikiye Filemom ati, «Namba unyiyumvira
[239] ko dusangiye igikorwa, umwakire nk'uko nanje wonyakiriye. Ariko asangwa hari ico yaguhemukiyeko, canke umwenda agufitiye, ubimparureko.»

Raba akarorero keza k'urukundo rw'umunyavyaha yihanye! Uwo musuku yari yivye shebuja nta kintu yari afise co kuriha uwo mwenda. Uwo munyavyaha yivye Imana imyaka yari kumukorera nta co afise co guhanagura uwo mwenda. Yesu ahagarara hagati y'umunyavyaha n'Imana, maze akavuga, ati Nzoriha uwo mwenda. Reka uwo munyavyaha abeho; nzobabara mu kibanza ciwe. Amaze kwiyemeza kuriha umwenda wa Onesimo, Paulo yibukije Filemoni ingene na we ubwiwe yari afitiye umwenda iyo ntumwa. Uwo mwenda yari we ubwiwe, uhereye igihe Imana yakoresheje Paulo ngo Filemoni ahindukirire Imana. Nuko amwinginga mu bugwaneza, asaba Filemoni ko, nk'uko yari yagiriye neza abera, yoruhura umutima w'iyo ntumwa mu kumwemerera ivyo yamusavye vyomutera umunezero. Yongeyeko ati, «Nkwandikiye nizigiye neza ko uzonyumvira, nzi neza ko uzokora n'ibiruta ivyo mvuze.»

Ikete Paulo yandikiye Filemoni ryerekana igikorwa c'ubutumwa bwiza ku migenderanire iri hagati y'umusuku na shebuja. Kuba umugurano vyari ibintu vyashinzwe hose mu bwami bwa Roma, kandi abasuku na bashebuja baboneka mu mashengero yose Paulo yakoreyemwo Mu bisagara, aho abagurano baruta abanyagihugu bidegemvya, amategeko akomeye bayabona nk'ikintu nkenerwa kugira abagurano bagamburuke. Umutunzi w'Umuroma kenshi yagira acagurano amajana n'amajana bavuye mu vyiciro vyose, mu bihugu vyo3e, kandi bakora ibikorwa bitandukanye. Yari abafiseko ububasha ku mitima no ku mibiri akabateza unibabaro yishakiye. Iyo hagize uwiyanka agashaka kwivuna mu kurwana na shebuja, umuryango wiwe wose wategerezwa gutangwako incungu. Agakosa

gato konyene, isanganya canke gufata ibintu minenerwe vyarahanwa ata kigongwe.

Ba shebuja bamwe bamwe bafata abagurano babo nk'abantu kuruta abandi, bakababagirira impuhwe; ariko benshi mu batunzi n'abaganwa ntibagarugwa mu gukurikira ivyifuzo vy'imibiri yabo, n'inda zabo, bakagira abagurano babo uko bishakiye kandi bakabahahaza. Muri rusangi iyo mico yari yarataye akaranga k'ubuntu. Nti cari igikorwa c'iyo ntumwa guhindura uko yishakiye canke bukwi na bukwi ibintu vyari vyashinzwe mu gihugu nk'ibisanzwe. Gukora atyo vyari kubera intambamyi iterambere ry'ubutumwa bwiza. Ariko yigishije ingingo zikora ku mutima w'umugenzo w'ubugurano kandi zishizwe mu ngiro, zari gusenyura uwo mugenzo wose. Yavuze ati, «Aho Mpwemu w'Umwami ari, ni ho haba umwidegemvyo.» 3 Ab'i Korinto 3:17. Umugurano ahindukiriye Imana yaca acika urugingo rw'umubiri wa Kristo, kandi ku bwo ivyo yategerezwa gukundwa kandi agafatwa nk'umuvukanyi, [240]
uwuzoraganwa hamwe na shebuja imigisha y'Imana n'amahirwe y'ubutumwa bwiza. Ku rundi ruhande, abasuku bategerezwa kurangura amabanga bajejwe, «ntimubakorere bakibahagarikiye, nk'abanezereza abantu, ariko mubakorere nk'abagurano ba Kristo, mukora ivyo Imana igomba bivuye ku mutima.» Abanyefeso 6:6. Ubukristo buzana ubumwe hagati y'umugurano na shebuja, umukozi w'ubutumwa bwiza n'umunyavyaha yafutanye yaronse muri Kristo ukwuhagirwa icaha. Bogejwe mu maraso amwe, bakorwako na Mpwemu umwe; kandi bagirwa umwe muri Kristo Yesu.

# Ikigabane oa 44 : Inzu Ya Kayisari

Ubutumwa bwiza bwamye buronka intsinzi ikomeye mu bantu boroheje cane. «Abo ubwenge bw'abantu bahamagawe atari benshi, abakomeye bahamagawe atari benshi, abapfasoni bahamagawe atari benshi.» 1 Ab'i Korinto 1:26. Nti vyari vyitezwe ko Paulo, umukene kandi akaba n'imbohe itagira cefo ca ruguru, yokwitabwaho n'abakire kandi bahambaye bo mu Baroma. Ikibi ciyerekana nk'igikayangana kandi gikwegakwega abantu maze kikabagira imbohe. Ariko mu bakozi barushe, abahahazwa n'agahotoro k'abo bakire, mbere no mu boro bo mu bagurano, benshi barumvirije amajambo ya Paulo kandi mu kwizera Kristo baronka ivyizigiro n'amahoro yabazaniye umunezero mu buzima bwabo bw'imiruho. Ariko naho igikorwa ca Paulo catanguriye ku boroheje na ba nyarucari, caranyengetereye kirashika no mu cicaro c'umwami. Muri ico gihe Roma yari umugwa mukuru w'isi yose. Abakayisari bahambaye batanga amategeko yubahirizwa hafi na buri gihugu kiri musi y'izuba. Umwami n'abateramyi biwe ntibari bazi uwo muntu aciye bugufi w'i Nazareti canke naho bamurabana urwanko n'agasuzuguro. Ariko mu kiringo kiri musi y'imyaka ibiri ubutumwa bwiza bwariciriye inzira buva mu nzu yoroheje y'imbohe bwinjira mu birimba vy'umwami. Paulo aboshwe nk'inkozi y'ikibi; «ariko ijambo ry'Imana ntiriboshwe.» 2 Timoteyo 2:9.

Mu myaka y'imbere Paulo yari yamamaje ubutumwa imbere y'abantu benshi, afise ubushobozi bukwega abantu, kandi ku bwo ibimenyetso n'ibitangaza yari yerekanye neza ko bwavuye ku Mana. Yari yahagaze ashize amanga hejuru y'abanyabwenge bo mu Bugiriki kandi ku bwo ubumenyi bwiwe n'imvugo yiwe ihiyanyuye yari yafunze akanwa ivyiyumviro vy'ubwenge bishira hejuru. Yari yahagaze ashikamye imbere y'abami n'abaganza, avuga ivyo ukugororoka, ukwigerera, n'urubanza rugiye kuza, kugeza aho abategetsi b'ubwibone bahinda umushitsi nk'uko umengo bariko
[241] barahangarana n' ubwoba bw'umusi w'Uhoraho. Nta karyo bene ako iyo ntumwa yaronka ubu, kuko yaba mu nzu ya wenyene, kandi

ata bandi yashobora kubwira ubutumwa bwiza kiretse abaza kumurondera aho. Nti yari yahawe itegeko nka Mose na Aroni ryo kuja imbere y'uwo mwami w'inshirasoni ngo mw'izina rya Ndiho amukankamire ku bwo ububisha n'agahotoro vyiwe. Ariko muri ico gihe nyene, aho umuvugizi wayo yasa n'aho adashobora gukorera ahabona, ni ho intsinzi ikomeye y'ubutumwa bwiza yabonekeye; kuko mu nzu y'umwami nyezina, havuye abantu biyongeyе kw'ishengero.

Nta hantu na hamwe hari intambamyi ku Bukristo nko mu kirimba c'i Roma. Nero yasa n'aho yazimanganije mu mutima wiwe ishusho y'Imana, mbere n'iyo umuntu, maze yambara iya Satani. Abafasha n'abahanuzi biwe nabo nyene basa na we-ibirandamuke, bataye akabanga, bononekaye mu ngeso. Ku maso y'abantu vyasa n'uko bidashoboka ko Ubukristo bukandagira mu kirimba no mu ngoro kwa Nero. Ariko, aha nyene, nk'uko vyabaye mu bindi bibanza, ni ho hagaragariye ukuri kwa ya majambo Paulo yavuze ngo ibirwanishwa vy'intambara yiwe «bifise ubushobozi bwo gusenyura intamenwa.» 2 Ab'i Korinto 10:4. Mbere no mu nzu ya Nero, intsinzi z'umusaraba zarabonetse. Mu bateramyi babi b'umwami arusha bose kuba mubi habonetse abantu bakiriye Kristo bahinduka abana b'Imana. Aba ntibabaye Abakristo mu mpisho, ahubwo babaye Abakristo izuba riva. Ntibakojejwe isoni n'ukwizera kwabo.

None vyagenze gute ngo inzira iboneke kandi Ubukristo bukandagire aho vyasa n'uko bidashoboka? Mw'ikete ryiwe yandikiye Ab'i Filipi, Paulo avuga ko iyo ntsinzi yo kuronka abizera Kristo mu nzu ya Nero ayikesha imvuto ziwe. Ku gutinya ko bokwibaza ngo imibabaro yiwe yabereye intambamyi ubutumwa bwiza, yabahumurije avuga ati: «Bene Data, nagomba ko mumenya yuko ivyambayeko cane-cane vyashize imbere ubutumwa bwiza.» Ab'i Filipi 1:12.

Igihe Abakristo ubwa mbere bumva ko Paulo azogendera I Roma, babibonye nk'ikimenyetso c'intsinzi y'ubutumwa bwiza muri ico gisagara. Paulo yari yaramamaje ukuri mu turere twinshi; yari yarakwamamaje mu bisagara bininibinini. Mbega tivyashoboka ko iyo ntwari mu kwizera iroranirwa mu kuzanira Kristo imitima no mu mugwa mukuru w'isi? Ariko ivyizigiro vyabo vyarayonze igihe bumva inkuru yuko Paulo yari yagiye i Roma ari imbohe. Bari bizeye badakekeranya ko ubutumwa bwiza, nibwashinga imizi muri

ico gisagara cari umutima w'isi yose, buzosanzara bidatevye mu mahanga yose, maze bugahinduka ikintu c'ububasha kw'isi. Mbega ingene bacitse inkokora! Ivyizigiro vya kimuntu vyari vyatakaye, ariko umugambi w'Imana wo si ko vyari. Ikirimba nticitaho insiguro za Paulo, ahubwo imvuto ziwe ni zo zakweze abantu kwizera Kristo. Imigozi yari iboheye abantu benshi mu caha, yayicagaguye
[242] ari imbohe. Yavuze ati: «Kandi abenshi bo muri bene Data bari mu Mwami wacu, baremoshejwe n'ingoyi zanje, barushiriza gutinyuka kuvuga ijambo ry'Imana bashize amanga.» Ab'i Filipi 1:14.

Ukwihangana n' akanyamuneza vya Paulo mu gihe kirekire c'umunyororo wiwe w'akarenganyo, ubugabo n'ukwizera vyiwe, vyabaye na ntaryo inyigisho. Umutima wiwe utari uri nk'uwo ab'isi, washinga intahe ko muri we hari ubushobozi buruta uburi mw'isi. Kandi ku bwo akarorero kiwe, Abakristo baronse inkomezi zihambaye nk'abashingira intahe ibikorwa vyo ku mugaragaro Paulo yari yarateshejwe gukora. Muri iyo nzira, imvuto za Paulo zakoze igikorwa gihambaye, ku buryo igihe inkomezi ziwe n'akamaro kiwe vyasa n'uko vyaciwe, kandi bakabona ko umengo nta kintu gihambaye yoshikako, ni ho nyene yashoboye kwegeraniriza Kristo umwimbu akuye mu miriia vyasa n'uko yirukanywemwo. Imbere y'uko iyo myaka ibiri y'umunyororo ihera, Paulo yashoboye kuvuga ati, «Ingoyi zanje zo ku bwa Kristo zimenyekana mu basoda bahora bashibama kwa Kayisari bose, no mu bandi bose,» kandi bamwe mu batumye indamutso ku Bafilipi bavuga ahanini!«ko bari abo mu rugo kwa Kayisari.» Umurongo wa 13; 4:22.

Ukwihangana co kimwe n'ubushizi bw'amanga bifise intsinzi. Ku bwo ubwitonzi mu mageragezwa, n'umwete mu bikorwa, imitima yoshobora kunyagwa igashikanirwa Kristo. Umukristo agaragaza ukwihangana n'akanyamuneza mu kigandaro n'imibabaro, akakira urupfu mu mahoro n'umutekano w'ukwizera kudahungabana, yokora vyinshi ku bwo ubutumwa kuruta ivyo yari gukora mu buzima burebure bw'ibikorwa bitunganye. Kenshi iyo umusuku w'Imana avanywe mu bikorwa vya misi yose, inzira zitangaje z'Imana amaso yacu atabona kure yibaza ko ari ubuhombe Imana izikoresha mu kurangura igikorwa kitari gushoboka mu bundi buryo. Umwigishwa wa Kristo igihe atagishoboye gukora ku mugaragaro kandi ashimitse ku bwo Imana n'ukuri, ntiyiyumvire ko ataco yofasha, ko ata gahembo yoronka. Abashingira intahe Kristo b'ukuri

ntibigera bakumirwa. Bafise amagara meza canke barwaye, mu buzima canke mu rupfu, Imana ikomeza kubakoresha. Kubona abasuku ba Kristo bahamwa kubera ububi bwa Satani, ibikorwa vyabo bikaburabuzwa, kubona batawe mw'ibohero, bakamanikwa canke bagaturirwa, kwari ukugira ngo ukuri kuronke intsinzi irushirije kuba iyihambaye. Ubwo abo bayoboke bateresha igikumu amaraso yabo ku gishingantahe cabo, abantu bari bakiri mu gukekeranya baranyuzwe bemera Kristo kandi bahagarara ku ruhande rwiwe bashize amanga. Mu minyota y'abapfuye bazira ukwizera havuyemwo umwimbu mwinshi w'Imana.

Umwete n'ubwizigirwa vya Paulo n'abafasha biwe, co kimwe n'ukwizera n'ubugamburutsi bw'aba bakiriye Kristo mu bihe biruhije, bitunga urutoke ubunebwe n'ukutizera kw'abakozi ba Kristo. Iyo ntumwa n'abo bikorana bategerezwa kuba barivuganye bati ntaco bimaze guhamagarira kwihana no kwizera Kristo abasuku ba Nero, mu gihe bari bahanzwe n'ibigeragezo bikomeye, bahanzwe n'ingorane nyinshi, kandi barwanywa biteye ubwoba. Naho bari kwemera ukuri, bashobora gute kugamburukira Imana? Ariko Paulo ntiyiyumviriye gutyo; yababwiye ubutumwa bwiza mu bwizigirwa, kandi mu bumvise amajambo yiwe hari bamwe bafashe ingingo yo kugamburuka batitayeho ibizobashikira. Batitayeho intambamyi n'akaga, barakiriye umuco, kandi bizera ko Imana izobafasha ngo umuco wabo ukayanganire abandi. Abantu ntibakiriye ukuri mu nzu kwa Kayisari gusa, ahubwo bamaze guhinduka bagumye muri iyo nzu nyene. Ntibahisemwo guheba igikorwa bajejwe ngo ni uko abo bibana batazoborohereza. Ukuri kwari kwabasanze aho kandi aho nyene ni ho bagumye, bagaragaza ku bwo ubuzima bwabo bwahindutse hamwe na kamere kabo, ubushobozi bw'uko kwizera gusha guhindura abantu. [243]

Hoba hari bamwe bafata ubuzima barimwo nk'icitwazo co kudashingira intahe Kristo? Nibarabire kuri abo bigishwa bo mu nzu ya Kayisari-ububi bw'uwo mwami, ubushurashuzi bwo mu kirimba. Nta buzima bwobera intambamyi idini, kandi bwosaba ukwitanga canke bwoba mu ngorane, kuruta ubwo abo bizera basha barimwo. Ariko hagati y'ingorane n'akaga bagumye ari abizigirwa. Kubera intambamyi zisa n' izo umuntu atokwihanganira, Umukristo ashobora kurondera ivyitwazo vyo kutagamburukira ukuri nk'uko kuri muri Yesu; ariko nta co afise yokwireguza. Abishoboye yaba

yerekanye ko Imana irenganya, kuko yoba yashize abana bayo ahantu agakiza kadashoboka. Uwufise umutima wanamvye ku Mana azoronka akaryo ko kumushingira intahe. Ingorane • nta nkomezi zizogira ngo zibuze uwahisemwo kwitwararika ubwami bw'Imana n'ukugororoka kwayo. Mu nkomezi aronkera mu gusenga no mu kwiga ijambo ry'Imana, azorondera ibitunganye kandi ahebe ibibi. Mu kurangamiza [U+25A0] kuri Yesu Uwatanguje kandi Azorangiza ukwizera, yihanganiye abayavyaha bamurwanya, umwizera azokwihanganira abamuhaririza n'abamutwenga. Kandi ubufasha n'ubuntu buhagije mu gihe cose vyarasezeranywe na We, mudahemuka kw'ijambo. Amaboko yiwe ahoraho akikiza umuntu amwegera akeneye ubufasha. Mu mababa yiwe dushobora kurindwa neza, tukavuga duti, «Igihe cose ntinye, nzokwizigira.» Zaburi 56:3. Ku muntu wese ayizigiye, Imana izoshitsa isezerano ryayo.

Mu karorero kiwe, Umukiza yarerekanye ko abigishwa biwe bashobora kuba mw'isi ariko atari abo isi. Ntiyazanywe no gusangira iminezero y'ubuhendanyi, gutwarwa n' imigenzo, no gukurikira ibikorwa vyayo, ahubwo yazanywe no gukora ubugbmbe bwa Se,
[244] kurondera no gukiza abazimiye. Umukristo agumije ibi bintu ku muzirikanyi, ashobora guhagarara atandujwe n'abamukikije. Uko yoba canke aho yoba hose, yaba uwuhambaye canke uworoheje, azogaragaza ububasha bw'idini y'ukuri mu gukora ivyo ajejwe mu bwizigirwa.

Kamere Rukristo ntikurira mu mwidegemvyo utagira imibabaro, ahubwo ikurira hagati yayo. Iyo ahanzwe n'urwanko n'abamurwanya ni ho umwigishwa wa Kristo yiyubara cane kandi agasenga bikomeye wa Mufasha nyene ubushobozi. Imibabaro ikomeye iyo yihanganiwe ku bwo ubuntu bw'Imana, izana ukwihangana, kuba maso, ubutwari n'ukwizigira Imana cane. Ni intsinzi y'ukwizera Rukristo ishoboza abigishwa biwe kubabazwa ariko bakagumana inkomezi; kugamburuka ariko kandi bagatsinda; kwicwa imisi yose ariko bakabaho; kwikorera umusaraba, kandi muri ubwo buryo bagatsindira.urugori rw'ubwiza.

# Ikigabane ca 45: Ivyandikiwe I Roma

*Iki Kigabane Gishitnikiye kn Makete Yandikiive Ab'i Kolosayi n'ab'i Filipi*

Intumwa Paulo mu vyamushikiye kare mu Bukristo bwiwe yaronse akaryo ko kwiga ubugombe bw'Imana ku bigishwa ba Kristo. «Yaduganywe mw'ijuru rya gatatu,» «muri paradiso, akumva ibitovugwa, ivyo umuntu atemererwa kuvuga.» Wenyene yemeza ko vyinshi mu «kwerekwa no guhishurirwa vyiwe» yari yabihawe «n'Umwami.» Gutahura inyigisho z'ukuri kw'ubutumwa bwiza kwangana «n'ukwa za ntumwa zihambaye cane.» 2 Ab'i Korintol2:2, 4, 1, 11. Yaratahura neza «uburebure bw'ubwaguke n'ubwo amakika, n'ubwo igihagararo n'ubwo amajepfo» «bw'urukundo rwa Kristo, ruruta uko rwomenywa.» Abanyefeso 3:18,19.

Paulo ntiyashobora kuvuga ivyo yerestwe vyose; kuko mu bamwumviriza harimwo abari guhava bakoresha amajambo yiwe ukutari ko. Ariko ivyo yahishuriwe vyamushoboje gukora nk'umurongozi n'umwigisha w'ubwenge, kandi vyamufashije kwandika ubutumwa yarungikiye amashengero mu myaka ya nyuma.Ivyo yabonye mw'iyerekwa na ntaryo vyamugumyemwo, bimufasha gutanga ishusho itomoye ya kamere Rukristo. Mu majambo no mu nyandiko, yatanze ubutumwa bwazaniye ishengero ry'Imana ubufasha n'inkomezi. Ubu butumwa bwiza abizera b'iki gihe akaga kageramiye ishengero, n'inyigisho z'ibinyoma bazohura nazo.

Icifuzo c'iyo ntumwa kuri abo yandikiye amakete yiwe yo guhanura no kwihaniza cari ukugira ngo «dushire ubwana, ntituzungazungishwe n'imipfunda, ngo tujanywe irya n'ino n'imiyaga yose y'inyigisho;» ariko bashike «ku kugiriranira ubumwe buva ku kwizera n'ukumenya Umwana w'Imana, kandi kugeza aho [245]
tuzoshikira kuba abantu bakuze, no ku rugero bw'ubwinshi bw'ukunengesera kwa Kristo.» Yinginze abigishwa ba Kristo bo mu bapagani kutagenda nk'uko «abandi banyamahanga bagenda,

bagendera mu bitagira ikimazi vyo mu bwenge bwabo, ivyiyumviro vyabo biri mu mwiza, batandukanijwe n'ubugingo buva ku Mana . . . ku bwo ukutamenya kuri muri bo n'ugukomantara kw'imitima yabo,» ariko «mugende nk'abanyabwenge, mwoye kugenda nk'imburabwenge, mugura uburyo mubugwiza.» Abanyefeso 4 :14, 13, 17, 18; 5 :15, 16. Yahimirije abizera guhanga amaso ku gihe Kristo azogarukira, we «Yakunze ishengero, kandi akaryigura,» ngo «aryishire, ari ishengero rifise ubwiza, ridafise amarabaga canke injebejebe canke ikintu cose gisa gityo-ishengero «ryera, ridafise agasembwa.» Abanyefeso 5: 25,27.

Ubu butumwa, bwanditswe n'ubushobozi atari ubwo umuntu ahubwo bwanditswe n'ubushobozi bw'Imana, bwuzuye inyigisho zari zikwiye kwigwa na bose kandi zikwiye gusubirwamwo kenshi. Muri zo herekanwa inyifato yo kwubaha Imana, harimwo inyigisho zotegerejwe gukurikizwa muri buri shengero, n'inzira ishikana ku bugingo budashira iragaragara. Mw'ikete ku «bera n'abizigirwa, muri i Kolosayi,» yanditse ari imbohe i Roma, Paulo arerekana akanyamuneza kiwe ku bwo ugushikama kwabo mu kwizera, inkuru yari yazaniwe na Epafura, uwo, nk'uko iyo ntumwa yanditse «yatumenyesheje urukundo rwanyu muhabwa na Mpwemu. Ni co gituma,» arabandanya avuga, «natwe, uhereye igihe twavyumviye, tudahengeshanya kubasengera, no kubasabira ngo mwuzuzwe ukumenya ivyo igomba n'ubwenge bwose no kumenya ivyo impwemu, kugira ngo mugende nk'uko bibereye abo Umwami wacu, mumunezereza muri vyose, mwama imbuto mu bikorwa vyiza vyose, mugwizwa no kumenya Imana, mushobozwa n'ubushobozi bwose, nk'uko inkomezi z'ubwiza bwayo ziri, ngo mwihangane rwose, ntimurambirwe, mubigiranye umunezero.»

Gutyo Paulo yashize mu majambo ivyo yifuriza abizera b'i Kolosayi. Raba ingene aya majambo ahanura abigishwa ba Kristo gushika ku rugero rwo hejuru! Yerekana ibintu bitangaje bishoboka mu buzima Rukristo kandi akerekana ku neza ko imihezagiro abana b'Imana bashobora kuronka itagira imbibe. Bakuze buri mwanya mu kumenya Imana, bashobora kugenda biyubura mu nkomezi, bava ku burebure baja ku bundi mu buzima Rukristo, gushika aho ku bwo «ubushobozi bwiwe butangaje» bashobozwa «kuragariwa n'abera iragi ryo mu muco.»Iyo ntumwa yashize hejuru Kristo imbere ya bene Se nk'Uwo Imana yakoresheje mu kurema ibintu

vyose kandi ni na We yakoresheje mu kubarokora. Avuga ko ikiganza gifatiriye amasi mu kirere, kikagumya urutonde n'ibikorwa bidahumeka vy'ibintu vyose biri mw'isi Imana yaremye, ni ca [246]
kiganza cabambwa ku musaraba ku bwabo. Paulo yanditse ati, «Vyose vyaremwe na We, ivyo mw'ijuru n'ivyo mw'isi, ibiboneka n'ibitaboneka, uri intebe z'icubahiro, uri ubwami, uri ubukuru, uri ububasha: vyose vyaremwe na We, biremerwa kuba ivyiwe: We yabayeho vyose bitarabaho, kandi kuri We ni ho vyose bifataniye.» «Namwe abari baratandukanijwe n'Imana kera, mugahindurwa abansi bayo mu mitima yanyu n'ivyo mwakoze bibi, none yabuzurije na yo mu mubiri wiwe w'umuntu ku bwo urupfu yapfuye, ngo abashikane imbere yayo muri abera, mudafise agasembwa, mutagira ico mugawa.

Umwana w'Imana yaricishije bugufi ngo ashire hejuru umuntu yaguye. Ku bwo ivyo yasize amahanga atacumuye yo hejuru, ba bandi mirongo icenda n'icenda bamukunda, maze aza kuri iyi si «yacumitiwe ivyacu bicumuro» kandi «yajanjaguriwe ivyacu bigabitanyo.» Vesaya 53:5. Muri vyose yagizwe nka bene Se. Yahindutse umubiri, nk'uko natwe turi. Yaramenye ico ari co inzara n'inyota n'uburuhe. Yaramirwa n'imfungurwa kandi akaruhurwa n'itiro. Yari kavantara n'ingenzi kw'isi- mw'isi, ariko atari uw'isi; yageragejwe nk'uko abagabo n'abagore b'iki gihe bageragezwa, ariko yabayeho ubuzima butagira icaha. Umugwaneza, w'impuhwe, umunyembabazi, yama yitayeho abandi, yagaragaje kamere y'Imana. «Uwo Jambo yihaye umubiri, abana natwe, . . . yuzuye ubuntu n'ukuri.» Yohana 1:14. Abakolosayi bari bazungurutswe n'ibikorwa n'imibereho ya gipagani, bari mu kaga ko kuja kure y'uguca bugufi kw'ubutumwa bwiza, kandi Paulo, mu kubagabisha kuri ivyo, abereka ko Kristo ari we gusa buhungiro. Yanditse ati, «Nagomba ko mumenya ukuntu mbarwanira intambara, mwe n'ab'i Lawodikiya n'abatarankubita ijisho bose uko bangana, kugira ngo imitima yabo ireme, kuko bamatanirijwe mu rukundo ngo bahabwe itunga ryose ry'ugutahura ata mazinda, babone kumenya ibanga ry'Imana, ni ryo Kristo, muri We ni ho itunga ryose ry'ubwenge n'ukumenya ryahishijwe.

«Mvuze ivyo kugira ngo ntihagire uwubahendagirisha amajambo y'inyosha.... Nk'uko mwakiriye Kristo Yesu Umwami wacu, abe ari ko mugendera muri We: mushinze imizi muri We,

mwubaka muri We, mushikamijwe n'ukwizera rvk'uko mwigishijwe, murushiriza gushima.Mwirinde, ntihakagire uwubagira inyagano, abanyagishije ubwenge bw'abantu ari ibihendo vy'ubusa, bikurikira akaronda k'imigenzo y'abantu, bikurikira ivya mbere vyo mw'isi, bidakurikira Kristo. Kuko muri We ari ho haba ukunengesera kwose kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri. Kandi munengeserezwa no kumubamwo, ni We mutwe w'ubukuru bwose n'ububasha bwose.»

Kristo yari yarabuye ko ababeshi bazokwiyadukiza, «muri bo ubugarariji buzogwira» kandi «urukundo rwa benshi ruzokonja.» Matayo 24:12. Yari yaragabishije abigishwa ko ishengero rizogeramirwa cane n'ako kabi kuruta agahamo k'abansi baryo. Paulo [247]
yarabagabishije yisubiriza ku bwo abo bigisha b'ibinyoma. Ako kaga bategerzwa kukirinda kuruta ibindi vyose; kuko mu kwakira abigishwa b'ibinyoma boba bugururiye amakosa umwansi yokoresha mu kuyovya ubwenge bwo gutahura ivy'impwemu kandi agahungabanya ukwizera kw'abasha bakiriye ubutumwa bwiza. Kristo ni We gipimo co gusuzuma izo nyigisho. Ibintu vyose bidahuje n'inyigisho ziwe bategerezwa kubitera umugongo. Kristo yabambwe ku bwo icaha, Kristo yazutse mu bapfuye, Kristo yaduze mw'ijuru-ubu ni bwo bwari ubumenyi bw'agakiza bategerezwa kwiga no kwigisha.

Izi mpanuro z'ijambo ry'Imana kuri aka kaga kazogeramira ishengero rya Kristo ni izacu uyu musi. Nk'uko vyabaye mu gihe c'intumwa, abantu bakoresheje imigenzo n'ubwenge bw'isi mu kugerageza gusenyura ukwizera kwo mu Vyanditswe Vyera, ni ko n'ubu, akoresheje ivyiyumviro biryohera ugutwi bihinyura Ivyanditswe, n'inyigisho zivuga ko umuntu ataremwe ahubwo yavuye mw'ihindagurika, kwizera imizimu mu gukoresha ubwenge bw'isi mw'iyobokamana, kwizera ko Imana iri mu kintu cose, umwansi w'ubugororotsi arondera kuyobora abantu mu nzira zabuzanijwe. Ku bantu benshi Bibiliya ni itara ritagira amavuta, kubera bahindukirije ivyiyumviro vyabo mu miringoti y'ukwizera kutagira ifatiro itera gutahura ukutari ko n' urudubi. Igikorwa co guhinyura Ivyanditswe Vyera, mu gucagagura amajambo, mu kwiyumvira ibitari mu nyandiko, kugerageza gushira hamwe ya majambo yacagaguwe ukayaha ubusobanuro, ni igikorwa kiriko kirasenyura ukwizera kwa Bibiliya nk'ijambo ryahishuwe n'Imana. Kiriko kiraka ijambo

ry'Imana bushobozi bwo kugenzura, gushira hejuru no guhingura ubuzima bw'abantu. Muri uko kwizera imizimu, abantu benshi bigishwa kwizera ko icifuzo c'umuntu kiri hejuru y'itegeko, ugukora ivyo umuntu yishakiye ari wo mwidegemvyo, kandi ko ico umuntu akoze adakwiye kukibazwa.

Umwigishwa wa Kristo azohura «n'amajambo y'inyosha» iyo ntumwa yagabishije abizera b'i Kolosayi. Azohura n'insiguro za Bibiliya zishimikiye ku nyigisho zizera ko abantu bavugana n'imizimu y'abapfuye, ariko ntategerezwa kuvyemera. Ijwi ryiwe ritegerezwa kwumvikana ryemeza neza ukuri kudashira kwa Bibiliya. Agumiza amaso kuri Kristo, ategerezwa kuja imbere mu nzira yaharuwe, atera umugongo ivyiyumviro vyose bidahuye n'inyigisho yiwe. Ukuri kw'Imana ni co kintu akwiye kwiyumvira no kwiga. Asabwa kuraba Bibihya nk'ijwi rivugana na we rivuye ku Mana. Gutyo rero azoronka ubwenge bukomoka ku Mana. Ubumenyi bw'Imana nk'uko buhishurirwa muri Kristo ni bwo bumenyi abakijijwe bose bategerezwa kugira. Ubu ni bwa bumenyi buhindura kamere y'umuntu. Bwakiriwe mu buzima, buzorema busha umuntu mw'ishusho ya Kristo. Ubu ni bwo bumenyi Imana irarikira abana bayo kuronka, iruhande yabwo ibindi vyose ni umuyaga [248] n'ubusa. Muri buri runganwe, no muri buri karere, umushinge w'ukuri wo kwubaka kamere wamye ari imwe mu ngirigo ziri mw'ijambo ry'Imana. Urugero rutabesha kandi rw'ukuri ni ugukora ico Imana ivuga. «Ivyagezwe Uhoraho yigisha biragororotse,» kandi «uwugenza atyo nta kizomunyiganyiza.» Zaburi 19 :8; 15:5. Ijambo ry'Imana ni ryo intumwa yakoresheje mu kurwanya ivyiyumviro vy'ibinyoma vyo mu gihe cabo, bavuga bati «Kuko irindi tanguriro ata muntu ashobora kurishiraho.» 1 Ab'i Korinto 3:11.

Igihe cose abizera b'i Kolosayi bahinduka kandi bakabatizwa barahira guhakana imyizerere n'ibikorwa bari bahoze bagenderamwo, bagasezerana kugamburukira Kristo. Mw'ikete ryiwe, Paulo yabibukije ivyo bintu, kandi abinginga kutibagira ko kugira ngo ntibibagire isezerano ryabo bategerezwa kwama bagira utwigoto barwaya ibibi vyogerageza kubifatira mu gakanu. Yavuze ati, «Asangwa mwarazuranywe na Kristo, murondere ibiri hejuru, iyo Kristo ari, avyagiye i buryo bw'Imana. Mushire imitima ku biri hejuru, ntimuyishire ku biri mw'isi. Kuko mwapfuye, kandi ubugingo bwanyu bukaba buhishanijwe na Kristo mu Mana.»» Nuko rero

umuntu wese ari muri Kristo, aba ari icaremwe gisha: ivya kera biba bihise, vyose bicika bisha.» 2 Ab'i Korinto 5:17. Mu bushobozi bwa Kristo, abagabo n'abagore baracagaguye iminyororo y'ingeso y'icaha. Baritandukanije n'ukwikunda. Inshirasoni yahindutse umupfasoni, imborerwa irabiheba, umusambanyi ahinduka umugororotsi mu vyiyumviro. Imitima yari yambaye ishusho ya Satani yarahindutse yambara ishusho y'Imana. Iri hinduka ubwa ryo ni igitangaza c'ibitangaza. Ihinduka rigizwe n'ijambo ry'Imana, ni ibanga rikomeye ry'ijambo ry'Imana. Ntidushobora kubitahura; dushobora kwizera gusa, nk'uko ijambo ry'Imana ribivuga, ni «Kristo muri mwebwe, ivyizigiro vy'ubwiza.

Iyo Mpwemu w'Imana ategetse ubwenge n'umutima, uwo muntu yahindutse araturika akaririmba indirimbo nsha; kuko atahura ko mu buzima bwiwe hashitse isezerano ry'Imana, ko ibigabitanyo vyiwe vyababariwe, icaha ciwe kigahanagurwa. Yarihanye imbere y'Imana ku bwo itegeko ryayo ryahonyanzwe, kandi yizera Kristo, yapfiriye umuntu ngo amutsindanishirize. «Kubera yatsindanishirijwe no kwizera,» afise «amahoro ku Mana ku bwo Umwami Yesu Kristo.» Abaroma 5:1. Ariko ku bwo ivyo, Umukristo ntakwiye kuzinga amaboko, ngo yishimire ivyo yamaze gushikako. Uwafashe ingingo yo kwinjira mu bwami bw'impwemu azotahura ko ububasha bwose na kamere -muntu katahindutSe, bikwegwa n'inkomezi z'ubwami bw'umwiza, zikoraniye kumurwanya. Buri musi ategerezwa kwishikanira Imana, buri musi arwana n'ikibi. In-
[249] geso za kera, kamere ikomoka ku bavyeyi zihengamiye ku kibi, bizorwana ngo bimutegeke, kandi ategerezwa kwama avyirinda, yihatira kuronka intsinzi mu nkomezi za Kristo.

Paulo yandikiye Ab'i Kolosayi ati, «Nuko mwice ingingo zanyu ziri mw'isi, mwagenderamwo kera, hamwe mwaba muri vyo. Ariko noneho mwiyambure n'ibi vyose: uburake, kujingitwa, urwanko rw'ubusa, gucokorana, kandi ntihakagire amajambo ateye isoni ava mu kanwa kanyu.... Nuko rero mwambare umutima w'ikigongwe, n'ineza, n'ukwicisha bugufi, n'ugutekereza, n'ukwihangana, mwihanganirana, muharirana, iyo umuntu agize ico apfa n'uwundi: nk'uko Uwami wacu yabahariye, namwe abe ari ko muharirana. Ikigeretse kuri ivyo vyose mwambare urukundo, ni rwo mugozi uzana gutungana. Kandi amahoro ya Kristo aganze mu mitima yanyu, ayo mwahamagariwe ngo mube umubiri umwe; kandi mube

abama bakenguruka.» Ikete ryandikiwe Ab'i Kolosayi ryuzuye ivyigwa vy'agaciro ntangere ku bantu bose biyemeje gukorera Kristo, ivyigwa vyerekana intumbero idasanzwe n'ubuziranenge buzoboneka mu buzima bw'umuntu aserukira vy'ukuri Umukiza. Umukristo akwiye guheba ibintu vyose vyomubuza gutera imbere mu nzira ija mw'ijuru, akwiye kandi gukura ico cose comutesha inzira ipfunganye, umwizera azogaragaza mu buzima bwiwe bwa buri musi imbabazi, ubugwaneza, kwicisha bugufi, ubwitonzi, ukwihangana, n'urukundo rwa Kristo. Ubushobozi bw'ubuzima bwo hejuru, butyoroye, butunganye ni bwo dukeneye kuruta vyose. Isi yuzuye ivyiyumviro vyacu, ariko bike vy'ubwami bw'ijuru.

Mu kigoro kiwe ko gushikira ivyo Imana imwifuriza, Umukristo ntakwiye kwihebura. Ubutungane mu ngeso no mu vy'impwemu, ku bwo ubuntu n'ubushobozi bwa Kristo, bwasezeraniwe bose. Yesu ni We soko ry'ubushobozi, isoko ry'ubugingo. Atuzana kw'ijambo ryiwe, kandi ku giti c'ubugingo atuzanira amababi akiza imitima irwaye. Atuyobora ku ntebe y'ubwami y'Imana, kandi agashira mu kanwa kacu isengesho ritunywanisha na Yo. Ku bwacu akoranya ibikoresho vyose vy'ubushobozi vyo mw'ijuru. Ku ntambwe yose dukorakora ubushobozi bwiwe buzima.Imana ntishira imbibe kw'iterambere ry'abo bose bifuza «kwuzuzwa ubumenyi bw'ubugombe bwayo mu bwenge bwose n'ugutahura kw'impwemu.» Mu gusenga, kwama bagavye, mu gukura mu bumenyi no gutahura, basabwa «gukomezwa n'ubushobozi bwose, nk'uko ubushobozi butangaje bwiwe buri.» Gutyo bazoba biteguye gukorera abandi. Umukiza yipfuza ko abantu bose, batyorowe kandi bakezwa, bomubera abafasha. Ku bwo ako gateka gakomeye twatewe, ni dushimire Imana, yo «yadushoboje kuraganwa n'abera iragi ryo mu muco: yadukijije ububasha bw'umwiza, atwimurira mu bwami bw'Umwana wiwe akunda.»

Ikete Paulo yandikiye Ab'i Filipi, nk'iryo yandikiye Ab'i [250]
Kolosayi, yaryanditse ari imbohe i Roma. Ishengero i Fihpi ryari ryarungikiye Paulo ingabire riciye kuri Epafurodito, uwo Paulo yita «mwene Data dufatanije igikorwa n'intambara, ari we ntumwa yanyu inkorera ivyo nkenye vyose.» Igihe yari i Roma, Epafurodito yari arwaye «ahakwa gupfa: ariko Imana imugirira imbabazi,» ni ko Paulo yandika avuga, ati «kandi si we wenyene, ni jwe yazigiriye, kugira ngo umubabaro wanje ntiwongerekane.» Bumvise

ivy'indwara ya Epafurodito, abizera b'i fihpi barababaye ku bwiwe, maze ahitamwo gusubira kubaraba. Paulo yanditse ngo «Yabagiriye igishika mwese, arandurwa umutima n'uko mwumvise yuko yari arwaye.. . ngira umwete wo kumurungika, ngo ni mwongera kumubona muze munezerwe, nanje ngabanuke umubabaro. Nuko mumwakirane umunezero mwinshi ku bwo Umwami wacu; kandi abameze nk'uwo mwame mububaha: kuko yagarukiye hafi yo gupfa ku bwo igikorwa ca Kristo, yahevye amagara yiwe, ngo ashikane ivyasigaye vyo kumfasha kwanyu.»

Paulo yarungikanye Epafurodito ikete ku bizera b'i Filipi ryo kubashimira ku ngabire bamuhaye. Mu mashengero yose iry'i Fihpi ni ryo ryerekanye umutima wo gutanga kuruta ayandi, mu guha Paulo ivyo akeneye. Mw'ikete ryiwe yanditse ati, «Kandi yemwe Bafilipi, namwe ni ico muzi yuko mw'itanguriro ry'ubutumwa bwiza, hamwe nava i Makedoniya, ata rindi shengero rya Kristo ryafatanije nanje mu vyo gutanga no guhabwa, atari mwebwe mwenyene. Kuko n'i Tesalonike na ho mwandungikiye ivyo kumara ubukene si rimwe ni kabiri kose. Si uko ndondera ingabire: ariko ndondera imbuto zigwiririkanye amaronko yanyu. Ariko mfise ibinkwiye vyose: mfise umurengera, kuko mpawe na Epafurodito ivyo mwarungitse, ari umubabwe umota neza, ikimazi cemewe gihimbaza Imana. Ubuntu bube muri mwebwe n'amahoro, biva ku Mana Data wa twese no ku Mwami Yesu Kristo. Nshima Imana yanje, uko mbibutse kwose, kandi uko nsenze kwose mbasengera mwese nezerewe, kuko mwafatanije nanje gukwiza ubutumwa bwiza, muhereye ku musi wa mbere, mugashitsa n'ubu; kandi ico nizigiye ntakekeranya, ni uko uwatanguye igikorwa ciza muri mwebwe azogiheraheza gushitsa ku musi wa Yesu Kristo: nanje birambereye kubiyumvirako ntyo mwese, kuko mbafise ku mutima, kuko mu ngoyi zanje, no mu gukiranira ubutumwa bwiza no kubutsimbataza, mwese musangiye nanje ubuntu bw'Imana. Imana ni yo ntanzeko icabona c'ingene mbagirira igishika mwese.... Kandi ico nsengera, ni ukugira ngo urukundo rwanyu rugwire rwongerekane mu bwenge no mu kumenya kwose; murobanure ibidahwana, muhore mutagira ubupfunya canke ibigwisha gushitsa ku musi wa Kristo, mwuzuye imbuto zo kugororoka ziheshwa na Yesu Kristo, ngo muheshe Imana icubahiro n'ishimwe.»

[251] Ubuntu bw'Imana ni bwo bwashigikira Paulo ari mw'ibohero,

bukamufasha kunezerwa mu marushwa. Mu kwizera n'ivyizigiro yandikiye bene Data b'i Filipi ko ingoyi ziwe zashize imbere ubutumwa bwiza. Yemanze ati, «Bene Data, nagomba ko mumenya yuko ivyambayeko cane-cane vyashize imbere ubutumwa bwiza; bituma ingoyi zanje zo ku bwa Kristo zimenyekana mu basoda bahora badibama kwa Kayisari bose, no mu bandi bose: kandi abenshi bo muri bene Data bari mu Mwami wacu, baremeshejwe n'ingoyi zanje, barushiriza gutinyuka kuvuga ijambo ry'Imana bashize amanga.»

- Hari icigwa kuri twebwe mu vyashikiye Paulo, kuko bihishura uburyo Imana ikora. Umwami Imana ashobora gutanga intsinzi aho bisa n'uko atacovamwo kiretse kuneshwa. Turi mu kaga ko kwibagira Imana, mu kuraba ibintu biboneka, aho kurabisha amaso y'ukwizera ibintu bitaboneka. Iyo ubuhombe canke ivyago biteye, twitegura kurega Imana ngo ntaco yitayeho canke ngo ni umwicanyi. Iyo ibonye ko bibereye ngo dukurwe mu buzima bw'igikorwa mu buryo runaka, turagandara, ntitwibaze ko Imana yoba iriko iraronderamwo ineza yacu. Dukeneye kumenya ko igikangiro kiri muri wa mugambi wayo uhambaye, kandi ko musi y'inkoni y'imibabaro Umukristo ashobora rimwe na rimwe gukorera Umwami vyinshi kuruta ivyo amukorera mu mwidegemvyo. Paulo yereka Abafilipi ko Kristo ari We citegererezo mu buzima Rukristo, Uwo, «naho yari asanganywe ishusho y'Imana, ntiyiyumviriye yuko kuringanira n'Imana ari ikintu co kwumirako: ariko yisiga ubusa, yabira ishusho y'umugurano, acika uwusa n'abantu. Kandi abonetse nk'umuntu, yicisha bugufi, aragamburuka no gushitsa ku rupfu, kandi urupfu rwo ku musaraba.

Arabandanya ati, «Nuko rero abo nkunda, nk'uko mwamye mugamburuka abe ai ko mushitsa agakiza kanyu, mutinya muhinda agashitsi, yamara si iyo ndiho gusa, ariko n'ubu nyene naho ntari iyo ni murushirize. Kuko Imana ari yo ikorera mu mitima yanyu, ikabaha gukunda no gukora ibiyihimbara. Mukore vyose ata kwidodomba, ata guharira, kugira ngo ntimugire umugayo canke akarohe, mube abana b'Imana batagira agasembwa, hagati y'ab'iki gihe bagoramye b'ibidambidambi, abo mubonekeramwo nk'amatara mw'isi, mwerekana ijambo ry'ubugingo; kugira ngo mbone ico nzokwirata ku musi wa Kristo, yuko ntirukiye ubusa kandi ntaruhijwe n'ubusa.»Aya majambo yanditswe ngo afashe umuntu wese ari mu ntambara. Paulo ashira hejuru urugero rw'ubugororotsi

kandi akerekana ingene rwoshikirwa. Avuga ati, «mushitse agakiza kanyu, kuko Imana ari yo ikorera mu mitima yanyu.» Igikorwa co gushika ku gakiza ni igikorwa dukorana n'abandi. Hategerezwa kuba ugukorera hamwe hagati y'Imana n'umunyavyaha yihanye. Ibi birakenewe ku bwo kugira ingingo ngenderwako zigororotse
[252] muri kamere. Umuntu ategerezwa gukora ibisholoka vyose ngo atsinde ibimubuza gushikira ubugororotsi. Ariko intsinzi yiwe ayikesha Imana. Utwigoro tw'umuntu ntiduhagije. Hatabaye ubufasha bw'Imana nta co bimaze. Imana irakora kandi n'umuntu nawe agakora. Kurwanya ibigeragezo bihagaze ku muntu, ategerezwa kuvoma ubushobozi ku Mana. Ku ruhande rumwe hari ubwenge butagira imbibe, impuhwe, n'ubushobozi; ku rundi, hari intege nke, icaha, nta gifasha. Imana yifuza ko dutegeka ivyiyumviro vyacu. Ariko ntishobora kudufasha tutavyemeye kandi tudakoranye na yo. Mpwemu w'Imana akorera mu bushobozi n'ingabire umuntu yahawe. Ku bwacu twenyene ntidushobora gutegeka ivyifuzo vy'imibiri yacu ngo bihwane n'ubugombe bw'Imana; ariko «twemeye guhabwa ubushake,» Umukiza azobidukorera, «dushingure impari n'igishizwe hejuru cose, kihashiriwe kurwanya kumenya Imana, dufata mpiri ivyiyumvirwa mu mitima vyoise, ngo tubigomorere Kristo.» 2 Ab'i Korinto 10:5.

Uwuzokwubaka kamere ikomeye, igororotse, ashaka kuba Umukristo ari ku rugero rwiza, ategerezwa guheba vyose no gukora vyose ku bwa kristo; kuko Umukiza ntazemera ko dukorera abami babiri. Buri musi ategerezwa kwiga ico bisobanura kwitanga wese. Ategerezwa kwiga ijambo ry'Imana, yiga ubusobanuro bwaryo no kugamburukira amategeko ya ryo. Gutyo rero ashobora gushika ku rugero rw'ubugororotsi Rukristo. Ku musi ku musi Imana ikorera muri we, ikuzuza kamere izohagarara mu rubanza rw'imperuka. Kandi umusi ku wundi umwizera akorera imbere y'abantu n'imbere y'abamarayika umwimenyerezo uhambaye, werekana ico ubutumwa bwiza bushobora gukorera abantu baguye mu caha.

Paulo yanditse ati, «ku bwanje sinibwira yuko maze kugifata, ariko ico nkora ni iki kimwe gusa, nibagira ivyo inyuma, kandi nshingira ibiri imbere, mbandaniriza gushika aho dutanguranirwa, ku mpera y'umuhamagaro w'Imana muri Kristo Yesu wo kuja mw'ijuru.»

Paulo yakoze ibintu vyinshi. Kuva yiyemeje kugamburukira Kristo, ubuzima bwiwe bwaranzwe n'ibikorwa vy'urudaca. Yava mu gisagara aja mu kindi, ava mu gihugu aja mu kindi, agendagenda, avuga inkuru y'umusaraba, yunguka abakira ubutumwa bwiza, kandi ashinga amashengero. Ku bwo ayo mashengero yama afise imyitwarariko, kandi yanditse amakete menshi yo kubahanura. Rimwe na rimwe yarikoze ku mwuga wiwe ngo aronke ibimutunga vya buri musi. Ariko mu bikorwa vyose vy'ubuzima bwiwe, Paulo ntiyigeze yibagira intumbero imwe ihambaye-gukurikirana umuhamagaro wiwe wo kuja mw'ijuru. Intumbero imwe yamije ku muzirikanyi-kudahemukira Wa wundi yamwihishuriye kw'irembo rya Damasiko. Nta na kimwe cari gifise ububasha bwo kumwibagiza iyo ntumbero. Guhaya umusaraba w'i Kaluvari-iki nico kintu nyamukuru camutuma avuga canke akora. Intumbero nyamukuru yagobera Paulo [253] gushikama mu buruhe n'ingorane bitegerezwa gutuma umukozi w'Umukristo wese yitanga atiziganije ku bwo igikorwa c'Imana. Ibihenda amaso vy'isi bizoshirwa imbere yiwe ngo bimukwegakwege bimukure ku Mukiza, ariko ategerezwa kuramiriza agana ku ntsinzi, yereka amahanga, abamarayika, n'abantu ko ivyizigiro vyo kubona Imana bihwanye n'utwigoro n'ukwitanga ivyo vyizigiro bisaba.

Naho yari imbohe, Paulo ntiyacitse intege. Ahubwo, akamo k'intsinzi gasamiranira mu makete yandikiye amashengero ari i Roma. Yandikiye Abafilipi ati, «Mwame munezererwa mu Mwami imisi yose; ndabivuze ubugira kabiri: ni munezerwe....'Ntimugire ico mwiganyira; ariko muri vyose ivyo mugomba bimenyeshwe Imana, mu gusenga no kwinginga bifatanije no gukenguruka. Maze amahoro y'Imana aruta uko yomenywa n'umuntu wese, azoshibamira imitima yanyu n'ivyiyumviro vyanyu muri Kristo Yesu. Ibisigaye, bene Data, ivyo ukuri vyose, ivyo kwubahwa vyose,- ibigororotse vyose, ibitanduye vyose, ivy'igikundiro vyose, ibishimwa vyose, ni haba hariho ingeso nziza, ni haba hariho gushimwa, abe ari vyo mwiyumvira.» «Kandi Imana yanje izobamara ubukene bwanyu bwose, nk'uko itunga ry'ubwiza ryayo riri ryo muri Kristo Yesu.... Ubuntu bw'Umwami Yesu Kristo bubane namwe mwese.»

# Ikigabane ca 46: Mu Mwidegemvyo

Naho ibikorwa vya Paulo i Roma vyahezagiwe bigatuma abantu benshi bakira Kristo ndetse bigakomeza kandi bigatera intege abizera, ibicu vyo kurwanya umutekano wiwe n'ukuroranirwa kw'ishengero vyariko biriyegeranya. Igihe yashika i Roma yari yashizwe mu si y'uburinzi bw'intwazangabo itegeka abarinda umutekano w'umwami, umuntu w'intungane n'umwizigirwa, yamugiriye impuhwe asa n'uwufise umwidegemvyo wo kubandanya igikorwa co kuvuga ubutumwa bwiza. Ariko imbere y'uko iyo myaka ibiri y'umunyororo irangira, uwo mugabo yasubiriwe n'intwazangabo ata ciza Paulo yari ayitezeko.

Abayuda rero bahagurukiye Paulo kuruta uko babikoze imbere, maze bafatana n'icitso c'insimbarubebe y'umugore Nero yari yagize umugore wiwe wa kabiri, kandi kubera yari yarakiriye idini y'Abayuda, yakoresheje ubushobozi bwiwe bwose ngo abafashe gushika ku migambi yabo yo kwica iyo ntwari y'ukwizera Rukristo. Nta butungane Paulo yashobora kwitega kuri uwo Kayisari yari yitwayeko. Nero yari umuntu yononekaye mu ngeso, sindabibazwa, ariko kandi ashobora gushitsa imigambi y'ubwicanyi kuruta abandi bami babayeho imbere yiwe. Nta mutegetsi atwaza igitugu [254] kumurusha. Umwaka wa mbere w'ingoma yiwe wari waranzwe n'ukwicisha ishano murumunawe wo kuri mukase, kubera ari we yari yateguwe ngo asubire ku ngoma ya se. Nero yamanutse ku kibi aja ku kindi n'ubwicanyi ku bundi, aramanuka gushika aho yica nyina amuvyara hanyuma yica n'umugore wiwe. Nta kibi kibishe yashobora kwiyubara, nta gikorwa kigayitse yagera amajanja. Umuntu wese w'intungane yamubonamwo ububi n'agasuzuguro. Ido n'ido ry'ibibi yakoze mu kirimba ciwe riteye isoni, riragayitse, riteye ubwoba ku buryo ata wobidondangura. Ububi bwiwe bwatumye yankwa kandi azinukwa n'abantu benshi, mbere n'abamufasha mu bwicanyi bwiwe kuko ata kundi bari kugira. Bama bari mu bwoba bibaza amabi yimirije gukora. Ariko naho Nero yakora ubwo bwicanyi nticabuza ko abo atwara bamugamburukira.

Yari azwi nk'umutegetsi ntavuguruzwa w'isi yose yari izwi ico gihe. Ikiruta vyose, yari afise icubahiro c'imana, maze bakamusenga nk'imana.

Mu vyiyumviro vya kimuntu, vyagaragara ko umucamanza nk'uwo atazomwambika izera. Ariko Paulo yumva ko igihe cose azoyoboka Imana ata kintu na kimwe yategerezwa gutinya. Uwo yari yaramuzigamye muri kahise yashobora kumubera inkinzo akamukiza ubwicanyi bw'Abayuda n'ububasha bwa Kayisari.Kandi koko Imana yakingiye umusuku wayo. Aravye ivyo barega Paulo, yasanze bidafashe, kandi ibinyuranye n'ivyo bose bari biteze, kandi uravye ingene ubutungane bwa Nero bwahindagurika bivanye na kamere yiWe, Nero yavuze ko iyo mbohe ata caha kiyagira. Imvuto za Paulo ziba zirahavuye; yongera kuba umuntu yidegemvya.

Iyo urubanza rwiwe rwigizwayo, canke ku mvo iyo ari yo yose akaguma abohewe I Roma gushika mu mwaka wakurikiye, nta kabuza yari gusiga agatwe mu gahamo kabaye. Mu gihe Paulo yari aboshwe abakiriye Kristo basha bari babaye benshi cane ku buryo vyatangaje kandi bitera urwanko abategetsi.Ishavu ry'umwami ahanini ryazizirinze kubera abantu bo mu nzu yiwe bakiriye Kristo, niko kurondera icitwazo co gusuka ku Bakristo igikombe c'ubwicanyi bwiwe buzira akagongwe. Muri ico gihe hadutse i Roma umuriro uteye ubwoba waturiye hafi ica kabiri c'igisagara. Urukurukuru rwavuga ko Nero ari we ubwiwe yari yadometse uwo muriro, ariko kugira ngo ndhagire uwubica n'ikanda, yari yigize umugiraneza mu gutabara abateshejwe izabo n ababuze utwabo. Ariko naho vyari uko, yagirijwe ico kibi. Abanyagihugu barahagurutse n'ishavu ryinshi, maze kugira yiyeze, kandi arandure mu gisagara umugwi w'abantu yatinya kandi yanka, Nero yasutse ubwo kwicanyi ku Bakristo. Irementanya ryiwe ryarafashe, maze ibihumbi n'ibihumbi vy Abakristo - abagabo, abagore, n'abanabicwa urwo agashinyaguro.

Paulo yakingiwe ako gahamo, kuko amaze kubohorwa atatevye kuva i Roma. Aka kanya ka nyuma k'umwidegemvyo Paulo yagakoresheje neza mu gukorera mu mashengero. Yagerageje gukomeza ubumwe hagati y'amashengero y'Abagiriki [255]
n'amashengero yo mu buseruko no gukomeza imitima n'ivyiyumviro vy'abizera bahungabanijwe n'inyigisho z'ibinyoma zariko ziranyengetera zonona ukwizera. Imibabaro n'imyitwarariko Paulo

yaciyemwo vyari vyakoze ku nkomezi ziwe z'umubiri. Ubumuga bw'ubusaza bwari kuri we. Yumvise ko ariko akora igikorwa ciwe ca nyuma, kandi, uko igihe ciwe co gukora cagenda kigabanuka, ni ko yongereza ingoga. Umwete wiwe wasa n'uko utagira imbibe. Yihuta gufata imigambi, ntiyatebagana gutangura igikorwa, yari akomeye mu kwizera, yagendagenda mu mashengero, mu turere twinshi, kandi yakora uko ashoboye kwose ngo akomeze amaboko y'abizera, ngo babe abizigirwa mu kuzanira imitima Yesu, kandi mu bihe bigoye bari bimirije kwinjiramwo, bategerezwa kuguma ari abayoboke b'ubutumwa bwiza, bakaba ivyabona vy'intungane vya Kristo.

## Ikigabane ca 47: Umunyororo Wa Nyuma

Igikorwa ca Paulo mu mashengero amaze kubohorwa i Roma, nticashobora kwihisha abansi biwe. Uhereye mu ntango y'agahamo ka Nero Abakristo bamye na ntaryo ahantu hose bitwa idini y'icaduka. Nyuma y'aho gato, Abayuda bahakanye Kristo biyumviriye umugambi wo kurementaniriza Paulo ngo ni we yoheje abantu iciyumviro co guturira igisagara ca Roma. Mu ntango nta n'umwe yiyumviriye ko Pauio yokwagirwa n'ico caha; ariko bari bazi ko ikirego nk'ico, gishoboye kugaragara ko ari ukuri, nta kabuza ivya Paulo bizoba birangiye. Ku bwo gukovya kwabo, Paulo yongeye gufatwa kandi bihutira kurondera inzira yo kumufunga ubwa nyuma.

Mu rugendo rwiwe rwa kabiri i Roma, Paulo yaherekejwe n'abahoze bakorana na we; abandi barifuje gusangira na we iyo mibabaro, ariko yanka kubemerera ko bokwishira mu kaga. Igihe yarimwo cari kibi kuruta igihe yafungwa ubwa mbere. Agahamo ka Nero kari kagabanije cane igitigiri c'Abakristo i Roma. Ibihumbi n'ibihumbi vyari vyishwe bizira ukwizera, benshi bari bahunze ico gisagara, kandi abari basigaye baracinyizwa kandi bakabatera ubwoba. Ashitse i Roma, Paulo yaterewe mw'ibohero ry'umwiza, ngo agumeyo gushika ivyiwe birangire. Kubera yaregwa ko yakoreye igisagara n'igihugu icaha kirengeye ivyaha vyose, yacitse igicibwa mu maso y'amakungu yose. Ba bagenzi bakeyi bari basangiye na Paulo imitwaro, noneho batangura kumusiga wenyene, bamwe ku bwo kumuheba, abandi ku bwo kuja gukorera mu mashnegero atandukanye. Fugelu na Heremogene babaye aba mbere kwigendera. Hanyuma Dema, atewe ubwoba n'ingorane hamwe n'akaga kari imbere, ata iyo ntumwa iri mu gahamo. Keresikeni yarvmgitswe na Paulo i Galatiya, Tito i Dalumatiya, Tukiko i Efeso. Igihe yandikira [256]
Timoteyo, Paulo yavuze ti, «Luka gusa ni we twasigaranye.» 2 Timoteyo 4:11. Ntaho Paulo yari bwakenere ubufasha bwa bene Data nko muri ico gihe, aruhijwe n'ubusaza, imiruho y'ibikorwa, n'ubumuga, kandi yugaraniwe mu kumba gatose katagira umuco

k'ibohero ry'i Roma. Ibikorwa vya Luka, umwigishwa mukundwa kandi w'intungane n'umugenzi ntahemuka, vyahumurije cane Paulo kandi bimufasha kugumya imigenderanire na bene Data n'abandi bari hanze

Muri ico gihe c'amageragezwa umutima wa Paulo wahumurijwe na Onesiforo yamugendera kenshi. Uwo Munyefeso w'umutima yakoze ibishoboka vyose ngo aremurure umutwaro w'umunyororo w'iyo ntumwa. Umwigishwa wiwe mukundwa yari mu mvuto ku bwo ukuri, ariko we yidegemvya, kandi nta co atakoze ngo Paulo ashobore kworoherwa. Mw'ikete rya nyuma Paulo yanditse, avuga atya kuri uwo mwigishwa w'umwizigirwa: «Umwami agirire abo kwa Onesiforo ikigongwe, kuko yanduhura kenshi, kandi ntiyatewe n'isoni n'umunyororo wanje; ariko, ashitse i Roma, agira umwete wo kundondera, arambona. Umwami amuhe kuzoronka imbabazi ziva ku Mwami kuri wa musi.» 2 Timoteyo 1:16-18.

Icifuzo co gukundwa n'ukugirirwa impuhwe catewe mu mutima n'Imana ubwayo. Kristo, mu gihe ciwe c'akababaro katagira uko kovugwa i Getsemane, yarondeye ukuremeshwa kw'abigishwa biwe. Kartdi Paulo naho yasa n'uko atavyitayeho imiruho n'imibabaro, yari akeneye ko incuti ziwe zimuhumuriza kandi zikamuba hafi. Gushika kwa Onesiforo, kwerekanye ubwizigirwa bwiwe mu gihe c'irungu no kwigunga, kwazaniye umunezero n'akamwemwe umuntu yari yakoresheje ubuzima bwiwe akorera abandi.

## Ikigabane ca 48: Paulo Imbere Ya Nero

Igihe Paulo yasabwa kurenguka imbere y'umwami Nero ngo acirwe urubanza, vyasa n'uko gupfa ari nta gisivya. Ububi bw'icaha yaregwa, n' ubushangashirwe bafitiye Abakristo, ntacizere vyatanga ko hari iciza kivamwo. Mu Bagiriki n'ABaroma wari umugenzo wo kwemerera umuntu aregwa ngo akoreshe umushingwamanza amuburanire. Ku bwo ubushobozi bw'amajambo, kubwo ubuhinga bw'ururimi, kwinginga, gutakamba n'amarira, uwo mwitsa yarashika kenshi ko atuma ingingo ihinduka ku bwo ineza y'umunyororo, canke ivyo bidashobotse, agatuma igihano ciwe kigabanywa. Ariko igihe Paulo yahamagarwa kurenguka imbere ya Nero, nta muntu n'umwe yubahutse kumubera umuhanuzi canke umuvugizi; nta mugenzi yari i ruhande ngo apfume yumviriza ivyo bamuremetse, canke ngo yumvirize amajambo yavuze mu kwiregura. [257] Mu Bakristo b'i Roma, nta n'umwe yegereye ngo amube hafi muri ico gihe c'amageragezwa. Amajambo y'amizigirwa yo muri ico gihe yatanzwe na Paulo ubwiwe, mw'ikete rya kabiri yandikiye Timoteyo. Iyo ntumwa yanditse iti, «Mw'iburana ryanje rya mbere nta wampagaze i ruhande, ariko bose barantaye: icompa ntibabiharurweko. Ariko Umwami wacu ni we yampagarikiye, arandemesha, kugira ngo ubutumwa buvugwe nanje butagabanije, abanyamahanga bose babwumve: nuko mva mu menyo y'intambwe.» 2 Timoteyo 4:16-17.

Paulo imbere ya Nero- mbega ubudasa butangaje! Umwami w'igitugu uwo muntu w'Imana yategerezwa gushingira intahe ukwizera kwiwe imbere yiwe, yari yarashitse kw'isonga ry'ubushobozi bw'isi, ububasha, n'ubutunzi, kandi yamanutse agakora ibibi n'ivyaha vy'agahomerabunwa. Mu bushobozi no mu cubahiro ntawakorako. Nta n'umwe yavuguruza ububasha bwiwe, ntawarwanya ubugombe bwiwe. Abami baterera ingori zabo ku birenge vyiwe. Ingabo z'ubushobozi ntangere ni we yazitegeka, kandi amabendera yo ku mato yiwe yabura intsinzi. Igishushanyo ciwe cari gishinzwe mu mazu ya sentare, kandi amategeko

y'abakenguzamateka n'ingingo zafatwa n'abacamanza nta kindi zavuga kiretse ubugombe bwiwe. Imiliyoni n'imiliyoni z'abantu bamupfukamira bamuha icubahiro. Izina rya Nero ryahindisha isi yose umushitsi. Akujinyikiye waca witega kunyagwa, gutakaza umwidegemvyo, ubuzima; kandi igitsure ciwe catiny wa kuruta akaranda

Iyo mbohe y'umutama, itagira n'urumeya, itagira abagenzi, itagira umuvugizi, ihagarara imbere ya Nero-mu maso h'uwo mwami hagaragara ivyifuzo vy'isoni vyabogaboga muri we; mu maso y'uwo ashengezwa herekana umutima ata co wiyagiriza imbere y'Imana. Ubuzima bwa Paulo bwari baranzwe n'ubukene, ukwiyanka, n'imibabaro. Atitayeho ingene na ntaryo abansi biwe bamuvuga ukutari ko, bamwambika ibara, bamuhohotera, bagerageza kumutera ubwoba, yashize hejuru ata bwoba ibendera ry'umusaraba. Co kimwe na Shebuja, ntiyagira aho akika umusaya, yari ingenzi, kandi co kimwe na We, yari yabayeho ku bwo guhezagira abari mw'isi. Vyari gushoboka bite ko Nero, umuntu mahindagu, ikirandamuke, gutwaza igitugu ata co bimutwaye, ngo atahure canke ashime kamere n'imvo z'uyu mwana w'Imana? Ico kibanza c'amakoraniro cari cuzuye isinzi ry'abantu, baje kuraba no kwumviriza ibigiye kuba. Abahambaye n'aboroheje ni ho bari, abatunzi n'aboro, abize n'abataco bazi, abibone n'abiyoroheje, bose ata n'umwe azi ukuri kw'inzira y'ubugingo n'agakiza.

Abayuda bareze Paulo vya birego vya kera ngo agumura abantu kandi yigisha inyigisho z'ibinyoma, kandi baba Abayuda canke Abaroma bamurega ko ari we yoheje abaturiye igisagara ca Roma. Ico gihe bariko baramuhata ibirego, Paulo yagumye atekanye. Abanyagihugu
[258] n'abacamanza baramutangarira. Bari barumvirije imanza nyinshi kandi bari barabonye abagesera benshi, ariko ntaho bari bwigere babona imbohe ibonekako ubweranda mu buryo itekanye nk'iyo yari imbere yabo. Amaso y'intasobwa y'abacamanza, yamenyereye gusoma mu maso y'abanyororo, yagerageje kurondera mu maso ya Paulo ko hoboneka ikimenyetso co kwiyotsa icaha, ariko biba impfagusa. Igihe yemererwa kwiregura, bose bamwumvirije n'igishika cinshi.Paulo yongeye kuronka akaryo ko gushira hejuru ibendera ry'umusaraba imbere y'isinzi ry'abantu batangaye. Ubwo yatunga amaso iryo sinzi riri imbere yiwe,-Abayuda, Abagiriki, Abaroma,

n'abanyamahanga bavuye mu mihingo myinshi,-umutima wiwe wuzuye icifuzo c'uko bokizwa. Yibagiye aho ari, akaga kamukikuje, n'urupfu rwasa n'uko rumwegereje. Abona gusa Yesu, Umwe avugira kandi akinginga imbere y'Imana ku bwo abanyavyaha. Paulo avuga ukuri kw'inkuru nziza mu mvugo y'igitangaza birengeye umwana w'umuntu, n'ubushobozi. Yerekeje abamwumviriza ku kimazi catanzwe ku bwo umuntu yaguye. Yemanze ko hatanzwe ikiguzi ntangere ku bwo agakiza k'umuntu. Vyose vyarateguwe ku bwiwe ngo aronke uruhara ku ntebe y'ubwami y'Imana. Ijuru rifatanijwe n'isi n'intumwa z'abamarayika , kandi ibikorwa vy'abantu, vyaba vyiza vyaba bibi, biri imbere y'ijisho ry' Ubu tungane-Ntambibe.

Uku ni ko umuvugizi w'ukuri, umwizigirwa hagati y'abatizigirwa, intungane hagati y'abatari intungane, ahagarara nk'icariho c'Imana, kandi ijwi ryiwe ni ijwi rikomoka mw'ijuru. Nta bwoba, nta gahinda, nta gucika intege mu majambo canke mu maso hiwe. Akomezwa no kwiyumva ko ari umwera, yambaye ibirwanishwa vy'ukuri, anezerezwa n'uko ari umwana w'Imana. Amajambo yiwe ameze nk'akamo k'intsinzi karengeye induru y'intambara. Yemanga igikorwa catumye atanga ubuzima bwiwe, ko ari co gikorwa conyene gusa kitazokwigera kineshwa. Naho yopfa, ubutumwa bwiza ntibuzopfa. Imana iriho, kandi ukuri

kuzotsinda.Abenshi bamwitegereje uwo musi «babonye mu maso hiwe hasa n'ah'umumarayika.» Ivyakozwe 6:15. Nta na rimwe iryo koraniro ryari bwumve amajambo nk'ayo. Yaciye umurya wasamiraniye no mu mutima ukomantaye nk'ibuye. Ukuri, gutomoye kandi kwemeza, kwasenyuye ikinyoma. Umuco wakayanganiye mu bwenge bwa benshi mu nyuma banezerejwe no gukurikira imishwarara yawo. Ukuri kwavuzwe kuri uwo musi kwari kugendereye kunyiganyiza amahanga yose no kuzoramba mu bihe vyose, kugahindura imitima y'abantu mu gihe iminwa yakuvuze izoba icecekeye mu mva y'uwapfiriye ukwizera kwiwe. Nta na rimwe Nero yari bwumve amajambo nk'ayo yumvise uwo musi. Nta na rimwe yari bwahishurirwe ububisha bw'icaha ciwe. Umuco w'ijuru watobekeranije ivyumba vy'umutima wiwe wononekajwe n'icaha, maze ahindishwa agashitsi no kwumva ko hariho sentare azohagararamwo, [259]
we umwami w'isi, amaherezo akarengutswa, kandi ivyo yakoze bikaronka ingororano bikwiranye. Yatinye Imana y'iyo ntumwa,

maze ntiyubahuka gutsindisha Paulo, uwo ibirego bitari vyaronse ivyemezo. Agatima k'ubwoba kamara umwanya gafatiriye umutima wiwe wamenyereye gusesa amaraso.

Mu kanya gato ijuru ryugururiwe Nero uwo munyakibi yakomantaje umudma, kandi amahoro n'ubutungane aca asa n'uwuvyifuza. Uwo mwanya, umuhamagaro w'imbabazi na we nyene wari umushitseko. Ariko ico ciyumviro co gusaba imbabazi cabaye ico akanya gato. Nuko itegeko rivuga ko Paulo yosubizwa mw'ibohero; maze ubwo urugi rw'ibohero rwugarwa, urugi rwo kwihana kw'uwo mwami wa Roma ruba ruiugawe burundu. Nta mushwarara w'umuco w'ijuru wongeye kwinjira mu mwiza wari umutwikiriye. Bidatevye yari agiye kubabazwa n'uguhora kw'intahe y'Imana. Inyuma y'aho gato, Nero yafashe ubwato agiye mu ntambara rurangiranwa mu Bugiriki, aho yitesheje agaciro we n'ubwami bwiwe mu gukora ibintu biteye isoni kandi vy'imburakimazi. Agarutse i Roma n'icubahiro cinshi, yikoranirijeko abateramyi maze biyandagaza mu bushirasoni bw'agahomerabunwa.Hagati y'ibihimbaro vy'ubushirasoni humvikana ijwi ry'induru ivugira mw'ibarabara. Intumwa yarungitswe gusuma urusaku, igaruka izanye inkuru mbi ko Galiba, aherekejwe n'ingabo, ariko aregegereza Roma, ko umugumuko wateye mu gisagara/kandi ko amabarabara yuzuye isinzi ry'abantu, bahiga barondera agatwe k'umwami n'abamushigikiye, bariko baregereza ikirimba.

Muri ico gihe c'irinde, Nero ntiyari afise nk'umwizigirwa Paulo, Imana ishobora vyose kandi y'imbabazi yokwishimikiza. Ku bwo gutinya imibabaro n'urupfu rw'agashinyaguro vyomushikira ku bwo abo bagumutsi, uwo mwami atwaza igitugu yashatse kwiha urupfu ariko biramwanka mu nda. Atungwa n'ayo yameze yiruka nk'ikimaramare atagira ingabo zo kumukingira, arondera aho yihisha kure y'igisagara, maze yifuza ubuhungiro mu gihugu hagad nk'ibilometero bike uvuye mu gisagara, ariko ntiyaburonka. Bidatevye bavumbura aho yinyegeje, maze ubwo abagendera ku mafarasi bamukurikira bamwegereza, asaba umugurano ngo amwiyicire. Uko ni ko uwo mwami w'igitugu Nero yapfuye, akiri umusore, afise imyaka mirongo itatu n'ibiri.

## Ikigabane ca 49: Ikete Rya Nyuma Rya Paulo [260]

*Iki Kigabane Gishitnikiye kw'Ikete rya Kabiri Ryandikiwe Timoteyo*

Avuye mu kibanza ca sentare ya Kayisari, Paulo asubira mu kumba kiwe, azi neza ko ata kindi yungutse kiretse agahengwe k'akanya gato. Yari azi ko abansi biwe batazohumeka batararonka agatwe kiwe. Ariko kandi yari azi ko ukuri kwari kwatsinze mu mwanya muto. Kubona yaramamaje Umukiza yapfuye kandi akazuka imbere y'iryo sinzi ry'abantu bamwumvirije, ico conyene yari intsinzi. Uwo musi igikorwa cari catanguye, igikorwa kizokura kandi kigakomera, mbere igikorwa Nero n'abansi bose ba Kristo bazoruhira ubusa bagerageza kukirwanya canke kugisenyura.Yicara umusi ku wundi muri ako kumba muzirazuba, azi ko Nero avuze rimwe gusa ubuzima bwiwe bwoba butanzwe, Paulo yibuka Timoteyo kandi afata ingingo yo kumutumako. Timoteyo yari yashinzwe kuyobora ishengero ry'i Efeso, kandi kubera ivyo yari yasigaye inyuma igihe Paulo yafata urugendo rwiwe rwa nyuma atumbera i Roma. Paulo na Timoteyo bari bafatanijwe n'ubumwe bw'urukundo rwimbitse kandi rukomeye. Uhereye igihe yakira Kristo, Timoteyo yari yasangiye na Paulo ibikorwa vyiwe n'imibabaro yiwe, kandi ubucuti bwabo bwakomeje kwiyongera, bukomera kandi bwuzura ubweranda, gushika aho ivyo umwana yokorera se wiwe akunda cane kandi yubaha Timoteyo yabikoreye iyo ntumwa yashitse mu zabukuru kandi yaruhijwe n'ibikorwa. Nti bitangaje rero kubona Paulo yifuza kumubona mu gihe c'irungu.

Haciye amezi menshi atarimwo ingorane imbere y'uko Timoteyo ashika muri Asiya ya Hafi. Paulo yari azi ko ubuzima bwiwe buri mu mayirabiri, kandi yatinya ko Timoteyo yohava ashika acerewe ntamubone. Yari afitiye impanuro n'inyigisho zikomeye uwo musore, yari yashinzwe amabanga ahambaye; kandi ubwo yamusaba ngo aze adatevye, yabwiye umwanditsi ngo yandike iki gishingantahe c'amajambo yo kuraga, ayo atashobora kwihanganira no kwigumizamwo. Umutima wiwe wuzuye urukundo ku bwo uwo mwana

wiwe yavyaje ubutumwa bwiza no ku bwo ishengero arongoye, Paulo yifuza kwereka Timoteyo akamaro ko kuba umwizigirwa kw'ibanga ryeranda yabikijwe.

Paulo yatanguje ikete ryiwe n'iyi ndamutso: «Kuri Timoteyo, umwana wanje nkunda: ubuntu n'imbabazi n'amahoro bibe kuri wewe, biva ku Mana Data wa twese no kuri Kristo Yesu Umwami wacu. Imana, nkorera nkurikiye ba sogokuruza, mfise umutima utanduye, utarimwo ijwi rinyagiriza ikibi, ndayishimira yuko nkwibuka ubudasiba, uko nsenze, ijoro n'umurango.»Iyo ntumwa rero iherako yereka Timoteyo ko bikenewe gushikama mu kwizera. Yanditse ngo, «Ni co gituma nkwibutsa gufurura ingabire y'Imana iri
[261] muri wewe ngo yake, yagushizwemwo jno kurambikwako ibiganza vyanje. Kuko Imana itaduhaye umutima w'ubujora: ariko yaduhaye uw'ubushobozi n'urukundo n'ukwirinda. Nuko ntugire isoni zo gushingira intahe Umwami wacu, canke izanje imbohe yiwe. Ariko ufatanye nanje kwihanganira imibabaro kubw' ubutumwa bwiza, nkuk' ubushobozi bw'Imana bugushoboza.» Paulo yinginze Timoteyo kutibagira ko yahamagawe «n'umuhamagaro wera» ngo yamamaze ubushobozi «bw' uwahinduye urupfu ubusa, ubugingo no kutagipfa akabiserurisha ubutumwa Bwizafubwo butumwa bwiza,» ni ko avuga, «Nabushiriweho' kuba umuvuzi wabwo n'intumwa n'umwigisha w'abanyamahanga. Ni co gituma kandi mbabazwa ntya: yamara ntibintera isoni, kuko nzi uwo nizeye, kandi nzi' ntakekerariya yukw'ashobora kuzigama ikibitsanyo ciza namubikije gushitsa kuri wa musi.»

Mu gihe ciwe kirekire yamaze mu bikorwa, Paulo ntiyigeze ahemukira Umukiza wiwe. Aho yaba ari hose-haba imbere y'Abafarisayo buzuye umujinya, canke imbere y'abategetsi b'Abaroma; imbere y'abanyagihugu bashangashiwe b'i Lusitira, canke imbere y'abanyavyaha bo mw'ibohero ry'i Makedoniya banyuzwe n'inyigisho ziwe; canke aharira n'abasozi ba bwa bwato bwagira isanganya bari bagize ubwoba, canke ahagaze wenyene imbere ya Nero yiregura ngo akize agatwe-ntiyigeze akorwa n'isoni z'igikorwa yariko arashingira intahe. Intumbero nyamukuru y'ubuzima bwiwe Rukristo yari ugukorera uwo izina ryiwe ryahoze rimutera iseseme; kandi ku bwo iyo ntumbero nta mwansi canke agahamo kari kashoboye kumutesha inzira. Ukwizera kwiwe, kwakomejwe n'ibimurwanya, kandi kwezwa n'ukwitanga, kwa-

mushize hejuru kandi kuramukomeza. Paulo arabandanya ati, «Weho, mwana wanje, ugirire ubushobozi mu buntu buri muri Kristo Yesu, kandi ivyo wanyumvanye mu maso y'ivyabona vyinshi, ubishikirize abantu bo kwizigirwa, bazoshobora kuvyigisha n'abandi. Ufatanye nanje kwihanganira imibabaro, nk'uko bikwiye umusoda mwiza wa kristo Yesu.»

Umukozi w'ukuri w'Imana, ntazozibukira imiruho canke amabanga ajejwe. Mw'Isoko ritigera rihemukira abaronderana ukuri ubushobozi bw'Imana, avomamwo inkomezi zimufasha kurwana kandi akanesha ikigeragezo, no gukora ibikorwa Imana yamujeje. Kamere y'ubuntu aronka, bwagura ubushobozi bwiwe bwo kumenya Imana n'Umwana wayo. Umutima wiwe uhar.inira kwifuza gukorera Umwami wiwe igikorwa gishimwa. Kandi ubwo akomeza urugendo1 liiu nzira Rukristo, ni ko «akomerera mu buntu buri muri Kristo Yesu.» Ubwo buntu bumushoboza kuba icabona cizigirwa c'ivyo yumvise. Ntakengera canke ngo afate minenerwe ubumenyi yahawe n'Imana, ahubwo ashikiriza ubwo bumenyi abantu b'abizigirwa, na bo bazobwigisha abandi.

Muri iri kete kuri Timoteyo, Paulo yashize imbere y'uwo [262]
mukozi w'umuyabaga urugero rwo hejuru, amwereka ibikorwa bimwega nk'umukozi wa Kristo. «Wame ugira umwete wo kwiha Imana nk'uwamaze kurama,» ni ko iyo ntumwa yanditse, «umukozi atarinda guteterwa, aramiriza neza mw'ijambo ry'ukuri.». «Ukwifuza kw'ubusore uguhunge: maze ukurikize ukugororoka n'ukwizera n'urukundo n'amahoro, ufatanye n'abambaza Umwami wacu n'imitima itanduye. Ariko ibihari vy'ubupfu n'ivy'ubutungu ntukavyemere, uzi yuko bivyara intonganya. Kandi umusuku w'Umwami wacu ntakwiye gutongana, ariko akwiye kugira ineza kuri bose, no kwihangana, no guhanurisha ubugwaneza abamuhaririza, ngo kumbure, bishobotse Imana ibahe kwihana ngo bamenye ivy'ukuri.»

Iyo ntumwa yagabishije Timoteyo ngo yirinde abigisha b'ibinyoma bazogerageza kunyengetera mw'ishengero. «Ariko umenye yuko,» niko yanditse avuga, «mu misi y'iherezo hazoza ibihe bigoye. Kuko abantu bazoba bikunda gusa, bakunda amahera, birarira, bibona, batumva, batukana, batumvira abavyeyi, intashima, abanegura ivy' Imana;. . . bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bahakana ubushobozi bwakwo: abameze batyo wame ubatera

umugongo.» «Abantu babi, bo n'abahumbuzi,» ni ko abandanya avuga, «bazimiza kandi bakazimizwa. Ariko weho ugume mu vyo wize, ukavyizezwa, kuk'uzi abakwigishije; kandi uzi yuk'uhereye mu buto bwawe wamye uzi ivyanditswe Vyera bishobora kukumenyesha ubwenge bwo kukuzanira agakiza gaheshwa no kwigisha umuntu, no kumuhana, no kumutunganya, no kumutoza indero nziza mu kugororoka: kugira ngo umuntu w'Imana abe uwushitse, afise ibimukwiye vyose, ngw'akore igikorwa ciza cose.» Imana yaratanze ibikoresho vyinshi vyo kurwanya n'ugutsinda ikibi kiri muri iyi si. Bibiliya ni inzu y'ibirwanisho dushobora kuvanamwo ibirwanisho.» Dutegerezwa gukenyeza ukuri. Ukugororoka gutegerezwa kuba icuma gikingira igikiriza. Inkinzo y'ukwizera itegerezwa kuba mu kuboko kwacu, inkofero y'agakiza mu ruhanga rwacu; n'inkota ya Mpwemu, ari ryo jambo ry'Imana, dutegerezwa gusatura inzira hagati y'imitego n'inzitizi z'icaha. Paulo yari azi ko imbere y'ishengero hari ibihe vy'akaga gakomeye. Yari azi ko igikorwa c'ubwizigirwa, gikomeye, gitegerezwa gukorwa n'abasigiwe uburongozi bw'amashengero; ni ko kwandikira Timoteyo ati, «Ndakwihanikiriza mu nyonga z'Imana no mu za Kristo Yesu azocirako iteka abazoba bariho n'abazoba bapfuye, kandi no kubwo kuzoboneka kwiwe n'ubwami bwiwe; uvuge ijambo ryTmana, uhore ugavye mu gihe gikwiye no mu kidakwiye, uhane, wihanize, uhanure, mu kwihangana kwose no mu kwigisha.»

Uku kwihanikiriza kw'umuntu w'umwete kandi w'umwizigirwa nka Timoteyo, ni icemezo kigaragaza ingene igikorwa cahawe
[263] umukozi w'ubutumwa bwiza gihambaye cane. Mu kwihanikiriza Timoteyo imbere y'intebe y'imanza y'Imana, Paulo amutegeka kuvuga ijambo ry'Imana, atari ukuvuga imigani n'imigenzo vy'abantu; kwitegurira gushingira intahe Imana igihe cose akaryo kabonetse- imbere y'abantu benshi canke mu mwiherero w'abantu bake, mu mayira no ku mashiga, ku bagenzi no ku bansi, mu gihe c'umutekano canke mu miruho n'irinde, bamurwanya canke atakaza utwiwe.

Kubera yatinya ko Timoteyo, asanzwe ari umuntu acisha make, yohava atirimuka ku ruhara rukomeye rw'igikorwa ciwe, Paulo yamwinginze kuba umwizigirwa mu kwihaniza icaha n'uguhana yivuye inyuma abagirwa n'ivyaha bikomeye. Ariko ivyo yategerezwa kubikora mu «kwihangana no kwigisha.» Yategerezwa kugaragaza ukwihangana n'urukundo vya Kristo, asobanura kandi

ukwihanikiza kwiwe agushigikirisha ukuri kw'ijambo ry'Imana. Kuzinukwa n'ukwihaniza icaha, kandi wereka umunyacaha ubugwaneza n'impuhwe, ni igikorwa gikomeye. Uko tugerageza cane gushikira ubugororotsi bw'umutima n'ubuzima, niko tuzobona ko icaha ari kibi cane, kandi tugafata ingingo yo kwiyamiriza umuntu wese aciye kubiri n'ukuri. Dutegerezwa kwirinda gukarira umunyavyyaha birengeje urugero, ariko kandi dutegerezwa kuba maso ngo ntitwibagire ko icaha ari ubugesera.Birakenewe ko twereka uwazimiye ukwihangana n'urukundo vya Kristo, ariko hari akaga ko kudahana ivyaha vyiwe, ku buryo yibaza ko atabereye igihano, maze akibaza ko abihaniwe yoba arenganijwe.

Abakozi b'ubutumwa bwiza rimwe na rimwe bakora nabi cane mu kudahana abanyavyyaha, gushika n'aho babigiramwo uruhara. Gutyo rero bagatanga impamvu zo kurenza uruho rw'amazi ku vyo Imana yiyamiriza, kandi bidatevye bahinduka impumyi ntibabe bagihana abo Imana ibategeka guhana. Uwirengagiza ivyaha ntahane abo Imana icirako iteka, igihe kizoshika bakore icaha kiruta ico mu guhana gukarira abo Imana yemera. Ku bwo kwiratira ubwenge bwa kimuntu, mu kwanka kwumvira Mpwemu Yera, n'ugutakigirira igishika ijambo ry'Imana, abantu benshi biyita Abakristo kandi bakiyumva ko bafise ubumenyi bwo kwigisha abandi, bazoshika aho birengagiza gukora ivyo Imana isaba. Paulo yabwiye Timoteyo ati, «Igihe kizoza, aho batazokwemera kwumva ukwigisha kuzima; ariko kuko amatwi abarya yifuza kwumva ibibanezereza, bazokwirundaniriza abigisha bahuje n'ukwifuza kwabo, kandi bazokwiziba amatwi, ngo ntibumve ukuri, bazozimira bakurikire imigani y'ibinyoma.»

Aha iyo ntumwa ntivuga uguhakana idini ku mugaragaro, ahubwo avuga Abakristo bafata ivyiyumviro n'ivyifuzo vyabo bakabigira umurongozi, maze gutyo bikabagira abaja. Abantu nk'abo bishimira kwumva inyigisho zidakankamira ivyaha vyabo canke ngo zicire urubanza intumbero yabo yo gukunda ibihimbaro vy'icaha. [264] Bababazwa n'amajambo atarya umunwa y'abasifku b'Imana b'abizigirwa, maze bakihitiramwo abigisha babashimagiza kandi bakabaryohera. Kandi no mu bibwira ko ari abakoii b'Imaria, h'arimwo abigisha ivyiyumviro vy abantu iho kwigisha ijambo' ry'Imana. Batirimuka ku kuri babikijWe, bakazimlfca ababaraba nk'ind'ongozi zabo mu vya Mpwemu. Mu nyigisho z'ivyagezwe vyayo vyera, Irnana yatanze igipimo co kugenderako mu buzima;

kandi yemanze ko gushika ku muhero w'isi, ibi vyagezwe bidahindutseko n'akazatsa canke akanyuguti, bizoguma bisaba abantu ko babikurikiza. Kristo yaje gushira hejuru ivyage2we no kuvyubahiriza. Yerekanye ko bishimikiye ku rukundo rw'Imana n'abantu. Mu buzima bwiwe bwite yerekanye akarorero ko kugamburukira ivyagezwe vy'Imana. Mu Nyigisho yatanze ku Musozi yerekanye ingene ivyo ivyagezwe vy'Imana bisaba birengeye ibikorwa biboneka kandi bikaraba n'ivyiyumviro n'intumbero z'umutima.

Ivyagezwe, iyo vyitondeye, bishikana abantu ku «kwikunkumura ukutubaha Imana n'ukwifuza ivy'isi,» no «kwama tudahugumba, tugororoka, twubaha Imana, mugihe ca none.» Tito 2:12. Ariko umwansi w'ukugororoka kwose yifatiye mpiri abari mw'isi, maze ayobora abagabo n'abagore guhonyanga ivyagezwe. Nk'uko Paulo yabibonye imbere y'igihe, abantu benshi bateye umugongo inyigisho z'ukuri kandi zitunganye z'ijambo ry'Imana, maze bihitiramwo abigisha bababwira imigani y'ibinyoma bahuje n'ukwifuza kwabo. Benshi mu bakozi b'Imana no mu Bakristo bariko barahonyanga amategeko y'Imana. Gutyo, Umuremyi w'isi aratukwa, maze Satani akitwengera mukubona ubuhendanyi bwiwe buroranirwa. Kubera ko ivyagezwe vy'Imana biterwa umugongo, ugukunda idini kuragabanuka, ubwibone bukiyongera, gukunda ivy'isi, kutumvira abavyeyi, n'ukwikunda; kandi ahantu hose, abantu biyumvira bibaza, bati hokorwa iki ngo dukosore ibi vyaha vyimonogoje bihere? Inyishu iri mu majambo Paulo yihanikirije Timoteyo ati, «Vuga ijambo ry'Imana.» Muri Bibiliya harimwo ingingo zitayovya zituyobora mu bikorwa vyacu. Ni amajambo yerekana ubugombe bw'Imana, n'ubwenge bwayo. Itahuza abantu ingorane nyamukuru z'ubuzima, kandi ku bantu bose bumvira inyigisho zayo izobereka, izobabera umuyobozi atazimiza, ibazigame ntibatakaze ubuzima bwabo mu miruho y'ubusa.

Imana yaramenyekanishije ubugombe bwayo, kandi ni ubusazi ku muntu avuguruza iryavuye rnu kanwa kayo. Uwufise Ubwenge butagira imbibe amaze kuvuga, nta kibazo umuntu yobaza, nta kintu co guhinyanyura gishoboka. Igisabwa conyene n' ugushira mu ngiro ata buryarya ubugombe Imana yashize ahagaragara. Kugamburuka ni co kintu ubwonge a'umutima-nama wokwihambirirako. Paulo arabandanya yihaniza: «Wirinde muri vyose, [265]
wihanganire imibabaro, ukore igikorwa c'umuvuzi w'ubutumwa

bwiza, ushitse igikorwa c'ibango ryawe.» Paulo yari yegereje kurangiza urugendo rwiwe, kandi yifuza ko Timoteyo yomusubkira, akarinda ishengero imigani y'ibinyoma n'inyigisho zigoramye umurwanizi mu nzira zose, azokoresha mu kugerageza kubatandukanya n'ubutumwa bwiza butagira amahinyu. Yamuhanuye kwitandukanya n'ugukurikira inyungu zose n' imyitwarariko yomubuza kwitanga atiziganije ku bw igikorwa.c'Imana; kwihanganira abamurwanya anezerewe, uruvugo, n'agahamo ubwizigirwa bwiwe buzomuzanira; kwerekana neza ubushobozi bwiwe bwo kuvuga ubutumwa mu gukoresha uburyo bwose afise mu kugirira neza abo Kristo yapfiriye.

Ubuzima bwa Paulo bwari ikimenyamenya c'ukuri yigishije, kandi aho ni ho hari ubushobozi bwiwe. Umutima wiwe wari wuzuye umwitwarariko w'igikorwa ajejewe, kandi yakora ari mu bumwe bwuzuye na We, we soko ry'ubutungane, ikigongwe, n'ukuri. Yihambirira ku musaraba wa Kristo nk'uko ari wo wonyene uzomuha intsinzi. Urukundo rw'Umukiza ni rwo rwamushoboza na ntaryo kwihangana mu ntambara arwana na kamere yiwe no mu ntambara arwana n'icaha ubwo yaja imbere mu gikorwa ca Kristo arwana n'urwanko rw'abo mw'isi, n'intambara y'abansi biwe.

Ico ishengero rikeneye muri iyi misi y'akaga, ni ingabo z'abakozi, nka Paulo, bimenyereje kuba ingirakamaro, bafise ubumenyi bwimbitse mu bintu vy'Imana, kandi buzuye ukwitanga n'umwete. Abantu bejejwe, bemera kwiyanka barakenewe; abantu batazozibukira ingorane n'ugukora ico bajejwe; abantu b'inshigwarimetse n'abanyakuri; abantu Kristo ari mu mitima yabo «ivyizigiro vy'ubwiza,» kandi n'iminwa yakozweko n'umuriro wera «bazovuga ijambo ry'Imana.» Igikorwa c'Imana kiraboroga kubwo kubura abakozi nk'abc, kandi amakosa y'agacamutwe, nk'uburozi sindamusiga, aroaona ubweranda kandi akamunga ivyizigiro vy'umugabane munini wa kiremwa muntu.

Ubwo abizigirwa, bakora badahumeka batwara ibendera y'ubugororotsi bariko baratanga ubuzima bwabo ku bwo ukuri, ni nde azoza ngo afate ikibanza cabo? Mbega abasore bacu bazemera gusigarana iragi ryera riri mu maboko ya ba se wabo? Bariteguye gusubira mu kibanza casizwe n'abizigirwa bapfuye? Impanuro z'iyo ntumwa bazozifata nka nkama, umuhamagaro wo gukora uzokwitabwa, hagati y'ibikwegakwegera abasore mu kwikunda

n'ukurondera ibihambaye? Paulo yaherahereje ikete ryiwe ku butumwa bw'umwihariko ku bantu batandukanye kandi yongera asaba ashimitse ko Timoteyo yomusanga adatevye, bishobotse urushana rutaragen.. Yaravuze ivyo. irungu ryiwe ryatewe n'uko bamwe mu bagenzi' biwe bamutaye, n'abandi vyari bikenewe ko batababa
[266] hamwe'nawe; kandi kugira ngo Timoteyo ntahave atinya kugenda kubera isheligero ry'i Efeso ryorhukenera, Paulo yavuze ko yari yarhaze gutunganya ico kibazo mu kurungika Tukiko ngo amusigarire.

Amaze kuvuga ivyabaye mu rubanza irhbere ya Nero, ingene bene Data bamutaye, n'ubuntu bw'Imarfa idahemuka kw'isezerano bwamukomeje, Paulo yaheraheje ikete ryiwe ashira Timoteyo mukundwa mu biganza vy'Umwungere Mukuru, We, naho abungere b'ibisongerezi botemba, yokomeza kubungabunga ubusho bwiwe.

## Ikigabane ca 50: Gucirwa Urwo Gupfa

Mu rubanza rwa nyuma rwa Paulo imbere ya Nero, uwo mwami yari yakozweko n'inkomezi z'amajambo y'iyo ntumwa ku buryo yigijeyo ingingo y'urwo rubanza, atambitse izera uwo musuku w'Imana canke atamwagirije icaha. Ariko ububisha bw'uwo mwami kuri Paulo bidatevye bwongera buravyuka. Ku bwo ishavu ry'uko adashoboye kubuza iterambere ry'idini Rukristo, nvbere no mu nzu nyezina y'umwami, afata ingingo ko igihe cose hoboneka icitwazo gifaditse, iyo ntumwa izoca yicwa. Ntivyatevye ko Nero afata ingingo yo gucira Paulo urwo gupfa. Kubera itegeko rya Roma ritemera ko Umuroma ahohoterwa ku mubiri, yaciriwe urwo gucibwa umutwe. Paulo yatwawe mu mpisho aho bamwicira. Abarorerezi bake ni bo bemerewe kuhaba; kuko abamuhama, batangazwa n'ubushobozi bwiwe bwo kwemeza abantu, batinya ko abantu bokwakira Kristo babonye ingene Paulo yicwa. Ariko n'abasoda bakomantaye imitima bari aho barumvirije amajambo yiwe kandi batangazwa no kubona anezerewe, mbere ahimbawe no kwumva ko agiye gupfa. Kuri bamwe mu babonye urupfu rwiwe, umutima wiwe w'ikigongwe ku bamwishe n'ukwizera Kristo kudahungabana gushika kw'iherezo, vyerekanye akanovera k'ubuzima gatanga ubuzima. Abantu barenga umwe barakiriye Kristo, uwo Paulo yamamaza, kandi mu bihe vyakui ikiye bateresha ukwizera igikumu c'amaraso yabo.

Gushika kw'isaha ya nyuma y'ubuzima bwiwe Paulo yerekanye ukuri kwa ya majambo yandildye Abakorinto: «Iniana, imwe yavuze ngo umuco wake, uvuye mu mwiza, ni yo yakiye mu mitima yacu, kwerekana urnuco, ni wo kumenya ubwiza bw'Imana buri mu nyonga ha Yesu Kristo. Ariko dufise ubwo butunzi mu nzavya z'ibum'oa, ngo ubushobozi buhebuje bube ubw'Imana, butavuye kuri twebwe. Dusugerezwa impande zose, ariko ntidushika mu mbombane; turazazanirwa, ariko ntituranduka umutima; turahamwa, ariko ntiduhebwa; dukubitwa hasi, ariko ntitugwaho: imisi yose tugendana mu mubiri urupfu rwa Yesu, ng'ubugingo bwa Yesu

na bwo buserukire ku mubiri wacu.» 2 Ab'i Korinto 4:6-10. Ukwikwiza kwiwe ntikwari muri we, ahubwo mu kubaho n'igikorwa ca Mpwemu cuzuza umutima wiwe kandi kigategeka iciyumviro cose kugamburukira Kristo. Uwavugishwa n'Imana yavuze ad, «Uzozigama amahoro masa umuntu akwegamikako umudma wiwe, kukw'akwizigiye.» Amahoro ava mw'ijuru yagaragara mu maso ha Paulo yatumye abantu benshi bakira ubutumwa bwiza.

[267]

Paulo yagendana n' akaranga ko mw'ijuru. Abahwana nawe bose bumva ko ari mu bumwe na Kristo. Kubera ubuzima bwiwe bwagaragaza ukuri yamamaza, bwatuma inyigisho ziwe zigira ubushobozi. Aha ni ho hari ubushobozi bw'ukuri. Igikorwa c'ubuzima bugororotse ni yo nsiguro yemeza abantu ngo bakire Kristo. Amajambo, n'aho yoba ntahinyuzwa ashobora gusa kuzana ibihari; ariko ubuzima bw'akarorero bwo kwubaha Imana bufise ubushobozi budashobora kuvuguruzwa. lyo ntumwa yibagiye imibabaro yayo yegereje, yitwararika ingene abo agiye gutandukana na bo bazokwifata imbere y'irementanya, urwanko n'agahamo. Abakristo bake bamuherekeje mu kibanza bamwiciyemwo yagerageje kubaremesha no kubakomeza mu gusubiramwo amasezerano yahawe abahamwa bahorwa ukugororoka. Yabameje ko ata na kimwe kizobura gushika mu majambo Umwami Yesu yavuze yerekeye abana biwe bababazwa b'intahemuka. Mu kanya gato bategerezwa kuremerwa n'ibigeragezo vyinshi vy'ubwoko bwinshi; bashobora kutoroherwa mu buzima; ariko bashobora kuremesha imitima yabo n'aya majambo y'Imana advuguruza, avuga ngo, «Nzi uwo nizeye, kandi nzi ntakekeranya yuko ashobora kuzigama ikibitsanyo namubikije gushitsa kuri wa musi.» 2 Timoteyo 1:12. Bidatevye ijoro ry'amageragezwa n'ububabare vyari bigiye kurangira, kandi umutwenzi w'umusi mwiza w'umunezero n'amahoro wari ugiye guseruka.

Iyo ntumwa yitegereza kure, ata gukekeranya canke ubwoba, ahubwo afise ivyizigiro vy'akanyamuneza kandi arindiranye igishika. Ubwo ahagarara mu kibanza co kwicirwamwo ntabona inkota y'umusoda cauke isi igiye vuba kwakira amaraso yiwe; araba hejuru mw'ijuru ritekanye ry'ubururu rya wa musi mwiza ku ntebe y'Uhoraho. Uwo mugabo yizera, yabona imbere yiwe ya ngazi Yakobo yerekwa, igereranya Krislo, afatanya isi n'ijuru, umuntu apfa n'Imana ihoraho. Ukwizera kwiwe gukomezwa no

kwibuka ingene abakurambere n'abavugishwa n'Imana bishimikije wa wundi amushigikira, akamuhoza, kandi ariko aratangira ubuzima bwiwe. Kuri aba bantu beranda kuva mu kinjana kuja mu kindi bashingiye intahe ukwizera kwabo, yumva icemezo ko Imana idahemuka. Bagenziwe b'intumwa, mu kuvuga ubutumwa bwiza bwa Kristo, bahwanye n' amacakubiri afatiye kw'idini n'ukwizera ibintazi kw'abapagani, agahamo, n'intambara, bataravye agaciro k'ubuzima bwabo mu kwikorera umuco w'umusaraba hagati y'umwiza w;iminyurakuzimu y'ukutubaha Imana-yumva abo bantu bashingira intahe Yesu nk'Umwana w'Imana, Umukiza w'abari [268]
mw'isi. Mw'ihohoterwa ryo ku mubiri, guturirwa, umunyororo, mu vyobo vy'intare, no mu vyobo vy'isi, yumva havamwo akamo k'intsinzi y'uwupfa azira ukwizera kwiwe. Yumva intahe y'abantu b'abizigirwa, naho banyazwe vyose, bakababazwa, bakicwa urwo agashinyaguro, bemangiye ukwizera kwabo badatinya, bavuga bati, «Ndazi neza uwo nizeye.» Abo bantu, bahevye ubuzima bwabo ku bwo kwizera, batangariza amahanga yose ko uwo bizeye ashobora kubakiza.

Acunguwe n'ikimazi ca Kristo, yogejwe icaha mu maraso yiwe, kandi yambitswe ukugororoka, Paulo ashinga intahe muri we ko umutima wiwe ufise agaciro mu maso y'Umucunguzi. Ubugingo bwiwe buhishijwe na Kristo mu Mana, kandi azi neza adakekeranya ko uwatsinze urupfu ashobora kuzigama ico abikijwe. Ubwenge bwiwe bwishimikiza isezerano ry'Umukiza, «Nanje nzomuzura ku musi w'iherezo.» Yohana 6:40. Ivyiyumviro vyiwe n'ivyizigiro vyiwe bihagaze ku muzo wa kabiri w'Umwami Yesu. Kandi ubwo inkota y'umusoda imanuka n'ibitutu vy'urupfu bizunguruka uwo agiye gupfa azira ukwizera kwiwe, iciyumviro ciwe ca nyuma citegereza imbere, ku ciyumviro ca mbere azokwikangurana, ngo abonane na wa Mutangabugingo, azomwakirana akanyamuneza katagira uko kovugwa.

Uhereye ico gihe, ibinjana n'ibindi vyararenganye kuva uwo mutama Paulo asheshe amaraso yiwe nk'uwushingira intahe ijambo ry'Imana na Yesu Kristo. Nta kuboko kwizigirwa kwanditse ku bwo uruvyaro ruzoza ivyanyuma vy'ubuzima bw'uyu mugogorotsi w'Imana, ariko Ijambo ryahumetswe n'Imana ryatuzigamiye igishingantahe c'amajambo yavuze ariko arapfa. Ijwi ryiwe ryasamiranye nk'inzamba mu myaka yose uhereye ico gihe,

rikomeza ibihumbi n'ibihumbi vy'ivyabona vya Kristo kandi ryibutsa mu mitima imenetse y'ibihumbi n'ibihumbi ya majambo y'umunezero w'intsinzi yiwe: «Kuko jeho ndiko ndasukwa ku gicaniro, igihe co gutaha kwanje kirashitse. Narwanye intambara nziza, narangije urugendo, nazigamye ukwizera: Ibisigaye, mbikiwe igitsibo c'ukugororoka, ico Umwami wacu, umucamanza agororotse, azompa kuri wa musi, kandi si jewe jenyene nzogihabwa, ariko kandi n'abakunze kuzoseruka kwiwe bose bazogihabwa.» 2 Tomoteyo 4:6-8.

## Ikigabane ca 51: Umwungere W'umwizigirwa

*Iki Kigabane Gishimikiye kw'Ikete rya Mbere rya Petero*

Ni bike bivugwa mu gitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa ku vyerekeye igikorwa intumwa Petero yakoze mu nyuma. Mu myaka y'ibikorwa vy'urutavanako yakurikiye isukwa rya Mpwemu Yera ku musi wa Pentekote, yari muri muri ba bandi bakoze batiziganije ngo bashikire Abayuda baje i Yerusalemu gusenga rhu gihe c'amasabukuru y'umwaka. Ubwo igitigiri c'abizera ciyongera i Yerusalemu no mu bindi bibanza vyagendewe n'intumwa z'umusaraba, italanto za Petero zagaragaje agaciro kadasanzwe kw'ishengero rya mbere rya Kristo. Igikorwa ciwe co gushingira intahe Yesu Umunyanazareti cageze kure kandi kiba kinini. Yari yashinzwe amabanga abiri. Yashingira intahe Mesiya imbere y'abati2era, akora atiziganya ngo abemeze ubutumwa bwiza; kandi hamwe n'ivyo yakoreye igikorwa gitangaje abizera, abakomeza mu kwizera Kristo. [269]

N'igihe Petero yari amaze gushika ku kwiyanka n'ukwisunga ubushobozi» bw'Imana, yahamagariwe gukora nk'igisongerezi c'umwungere. Kristo yari yabwiye Petero, imbere y'uko amwihakana, ati «Nawe niwamara guhinduka, Uz'uremeshe bagenzi bawe.» Aya majambo yasobanura igikorwa kinini kandi gihambaye iyi ntumwa izokora muri kazoza ku bwo abantu bazokwizera. Ku bwo iki gikorwa, ubuzinia bwa Petero bw'icaha n'umubabaro no kwihana vyari vyamuteguye. Ntiyashobora gutahura ko abizera bakeneye kwisunga Kristo, ataratahura intege nke ziwe. Mu mikuba y'ikigeragezo, yashoboye gutahura ko umuntu ashobora kugira uniutekano mu gihe yirinze ukwiyemera, kandi akishimikiza rwose ku Mukiza. Mw'ikoraniro rya nyuma rya Kristo n'abigishwa biwe ku kiyaga, Petero, amaze gusuzumwa n'iki kibazo incuro zitatu, «Urankunda ?» (Yohana 21:15-17), yari yasubijwe mu kibanza ciwe muri bamwe cumi na babiri. Igikorwa ciw'e yari yaceretswe; yategerezwa kugaburira ubusho bw'Umwami. Ubu rero amaze guhin-

duka n'ukwemerwa, ntiyasabwa gusa gukiza iziri hanze y'umukuku, ahubwo yasabwa n'ukuba umwungere w'intama.

Kristo yabajije Petero ikintu kimwe gusa ngo yemererwe gukora-«Urankunda?» Iki nico kintu nyamukuru gisabwa. Naho Petero yoba akwije ibindi, adakunda Kristo ntiyashobora kuba umwungere w'umwizigirwa wo kuragira umukuku w'lmana. Ubumenyi, ukwitanga, kumenya kuvuga, umwete-ivyo vyose birahambaye mu gikorwa ciza; ariko ata rukundo rwa Kristo mu mutima, igikorwa c'umukozi wa Kristo ntikirama. Urukundo rwa Kristo si ikintu wiyumvamwo gusa, ahubwo ni itegeko ngenderwako ry'ubuzima ritegerezwa kwigaragaza nk'ubushobozi buri mu mutima. lyo kamere n'inyifato y'umwungere bibaho bigaragaza ukuri ahagarariye, Umwami Imana azoshirako igikumu yemere ico gikorwa. Umwungere n'umukuku bazoba unnve, bafatanijwe n'ivyizigiro biniwe muri Kristo. Uburyo Umukiza yifashe mu migenderanire yiwe na Pelero bwari bugendereye kumwigisha no kwigisha bene Se. Naho Petero yari yihakanye Umwami wiwe, urukundo Yesu yari amufitiye ntigwigeze rutituka. Kandi ubwo iyo ntumwa yategeiezwa kubandanya igikorwa co kwigisha abandi, im-
[270] bere y'abanyavyaha yasabwa kugaragaza ukwihangana, impuhwe, n'urukuncio rubabarira. Yibutse intege nke n'ikosa ryiwe ubwiwe, yategerezwa gufata intama ajejwe n'urukundo nk'urwo Kristo yari yamugiriye.

Abana b'abantu, nabo ubwabo bahengamiye gukora ivyaha, kenshi na kenshi ntibereka ubugwaneza abari mu bigeragezo no mu vyaha. Ntibashobora gusoma mu mutima; ntibazi intambara n'imibabaro yabo. Bategerezwa kwiga gukankamira mu rukundo, gukubita ikoni ikomeretsa ariko igakiza, kugabisha rnu majambo y'ivyizigiro. Mu gikorwa ciwe, Petero yaragiye umukuku yabikijwe, kandi gutyo yerekanye ko abereye igikorwa n'ibanga yahawe n'Umukiza. Yamye na ntaryo ashira hejuru Yesu Umunyanazareti nk'ivyizigiro vya Isirayeli, Umukiza w'abantu. Ubuzima bwiwe yabutegetse kwisunga Shebuja. Mu buryo bwose bushoboka yagerageje kwigisha abizera gukora. Akarorero kiwe ko kwubaha Imana n'ugukora adahumeka kafashije abasore benshi kwihebera igikorwa co kuvuga ubutumwa. Ubwo imisi yahera, niko ububasha bw'iyo ntumwa nk'umwigisha n'umurongozi bwiyongera; kandi naho atibagira umutwaro wiwe wo gukorera Abayuda, yashinze intahe mu

bihugu vyinshi kandi akomeza ukwizera kwa benshi mu butumwa bwiza.

Mu myaka ya nyuma y'igikorwa ciwe, Petero yahumekewe kwandikira abizera «basanzariye i Ponto n'i Galatiya n'i Kapadokiya no muri Asiya n'i Bituniya.» Amakete yiwe yari agendereye kuremesha no gukomeza ukwizera kw'abari mu mageragezwa n'imibabaro, no gukangurira gukora ibikorwa vyiza vy'abo, kubwo ibigeragezo bari mu kaga ko kwibagira kwumira ku Mana. Ayo makete yerekana ko yanditswe n'umuntu imibabaro ya Kristo n'uguhoza kwiwe vyari vyaragwiriye muri we ; umuntu ubuzima bwiwe bwose bwari barahinduwe n'ubuntu, kandi yari afise ivyizigiro bidahungabana vy'ubugingo budashira. Mu ntango y'ikete ryiwe rya mbere uwo musuku w'Imana ageze mu zabukuru arahayagiza kandi agashima Umwami Imana: «Imana y'Umwami wacu Yesu Kristo, ari yo SE, iragahezagirwa,» niko avuga, «yatuvyaye ubwa kabiri nk'uko imbabazi zayo nyinshi ziri, kugira ngo tugire ivyizigiro bizima, ituvyaza ukuzuka mu bapfuye kwa Yesu Kristo, ngo tuze twegukire umwandu utazobora, utanduye, udakabirana, mwabikiwe mw'ijuru, mwebwe abazigamwa n'ubushobozi bw'Imana kubw'ukwizera, muzigamirwa agakiza kateguwe kuzohishurwa mu gihe c'iherezo.»

Ku bwo ibi vyizigiro bizima vyo kuzoragwa isi yagizwe nsha, Abakristo ba mbere baranezerwa, mbere no mu bihe bigoye kandi vy'akababaro. «Ivyo mubinezezererwe cane,» ni ko Petero yanditse, «naho ubu ari igihe gito mubabazwa n'ibibageragez a vyinshi, kuko bitobur?. kuza: kugira ngo kurama kw'ukwizera kwanyu, kurusha igiciro izahabu ishira, nah'ivugutirwa mu muriro, kuze kuboneke kuri n'ishimwe n'ubwiza n'icubahiro mu guhishurwa kwa Yesu Kristo: uwo muramukunda naho mutigeze kumubona, . . . bibatera [271]
kunezerwa akanyamuneza k'ubwiza katovugwa, muhabwa ikizanwa nukwizera kwanyu, ni co gakiza k'ubugingo bwanyu.»

Amajambo y'iyo ntumwa yandikiwe kwigisha abizera bo mu bihe vyose, kandi afise agaciro kadasanzwe ku bariho mu gihe «iherezo ry'ibintu vyose ryashitse.» Impanuro no kugabisha vyiwe, n'amajambo yiwe y'ukwizera - no kuremesha; akenewe n'umuntu wesa azozigama ukwizera kwiwe «gushitsa kw'iherezo,» Abaheburayo 3:14.

Iyo ntumwa yashaka icwigisha abizera ingene ari ikintu gihambaye kurinda ivyiyumviro kuzimirira mu bintu vyabuzanijwe

canke gutakaza inkomezi zabo mu bintu bitagira ikimazi. Abatifuza kuba inyagano z'ubuhendanyi bwa Satani, bategerezwa kurinda neza inzira z'umutima wabo; bategerezwa kwirinda gusoma, kuraba canke kwumva ibintu vyobosha ivyiyumviro vyanduye. Ubwenge butegerezwa kwirinda ikintu cose umurwanizi yobukwegakwegesha. Umutima utegerezwa kurindwa neza, bitabaye bityo ibibi vyo hanze bizovyutsa ivyo imbere, maze umuntu adobere mu mwiza. «Nuko rero mukenyere mu mitima yanyu, mwirinde ibiboreza, mwizigire rwose ubuntu muzozanirwa mu kuzohishurwa kwa Yesu Kristo;...ntimwishushanye n'ukwifuza kwanyu kwa kera kwo mu gihe c'ukutamenya kwanyu: ariko, nk'uko iyabahamagaye ari iyera, namwe abe ariko muba abera mu ngeso zanyu zose; kuko vyanditswe, ngo Mube abera; nk'uko nanje ndi uwera.» «Mumare igihe co kuba

inyambukira mutinya: muzi yuko ivyo mwacungujwe ngo muve mu ngeso zanyu z'imburakimazi mwatojwe na ba sogokuruza atari ibishira, nk'ifeza, izahabu, ariko mwacungujwe amaraso y'igiciro kinini, nk'ay'umwagazi w'intama utagira agasembwa canke ibara, ni yo ya Kristo: uwo yamenywe n'Imana kera, itanguriro ry'isi ritarashirwaho, ariko yerekanywe kw'iherezo ry'ibihe ku bwanyu, mwebwe abo yahaye kwizera Imana, ni yo yamuzuye mu bapfuye ikamuha ubwiza; ni co gituma ukwizera kwanyu n'ivyizigiro vyanyu biba mu Mana.»

Iyaba ifeza n'izahabu vyari bihagije kugura agakiza, ibaze ingene vyari kworohera uwuvuga ati, «Amafeza ni ayanje, n'amazaliabu ni ayanje.» Hagayi 2:8. Ariko amaraso y'agaciro y'Umwana w'Imana yonyene ni yo yashobora gucungura umunyavyaha. Umugambi w'agakiza washinzwe mu kwitanga. Intumwa Paulo yanditse iti, «Kuko muzi ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo, yuko naho yari umutunzi, yahindutse umworo ku bwanyu, kugira ngo ubworo bwiwe bubatungishe.» 2 aAb'i Korinto 8:9. Kristo yitanze ku bwacu ngo adukize ikigabitanyo cose. Kandi nk'umuhezagiro ntangere w'agakiza, «ingabire y'Imana ni ubugingo budashira, bubonerwa muri Kristo Yesu Umwami wacu.» Abaroma 6:23. Petero arakomeza avuga ati, «Nuko rero, ko mwejesheje
[272] imitima kwumvira ukuri, kugira ngo mukunde bene Data bitari uruheyiheyi, mukovye mu gukundana bivuye mu mitima.» Ijambo ry'Imana-ukuri-ni umuringoti Umwami Imana agaragarizamwo Mp-

wemu wiwe w'ubushobozi. Kwumvira iryo jambo bizana ivyamwa» bikenewe- urukundo rwa bene Data rutagira uburyarya.» Urukundo nk'urwo ruva mw'ijuru, kandi rutuma umuntu yiyumwira ivyo hejuru kandi agakora ibikorwa bitarimwo ukwikunda. Iyo urukundo rugizwe itegeko ngenderwako ry'ubuzima, umuntu «aba avutse ubwa kabiri, atavyawe n'imbuto ibora, ahubwo avyawe n'imbuto itabora, abiheshejwe n'ijambo ry'Imana ririho rigahoraho.» Uku kuvyarwa ubwa kabiri kuva ku kwakira Kristo nk'Ijambo ry'Imana. Iyo ku bwa Mpwemu Yera ukuri kw'Imana kwanditswe mu mutima, ivyiyumviro bisha biravyuka, kandi inkomezi zari zarasinziriye zirikangura zigakorana n'Imana.

Uku ni ko vyagendeye Petero n'abigishwa bagenziwe. Kristo ni we yahishurira ukuri abari mw'isi. Ni we yabivye imbuto itabora-ijambo ry'Imana-mu mitima y'abantu. Ariko inyigisho z'agaciro kanini z'uwo Mwigisha w'Agakura zabwiwe abantu batazitahuye. Igihe yari amaze kuduga mw'ijuru, Mpwemu Yera yibukije abigishwa inyigisho ziwe, ubwenge bwabo bwari mw'itiro buca burikangura. Ubusobanuro bw'aya majambo bwinjiye mu bwenge bwabo nk'ihishurirwa risha, maze ukuri, gutyoroye kandi kutanduye, kwironkera ikibanza. Nuko rero ibitangaza vyabaye mu buzima bwiwe bihinduka ivyabo. Ijambo ryashingira intahe muri bo, abantu yari yaritoranirije, kandi bamamaje ukuri guhambaye bati, «Uwo Jambo yihaye umubiri, abana na twe, . . . yuzuye ubuntu n'ukuri.» «Kandi ibibogaboga muri we ni vyo twahaweko twese, n'ubuntu bugerekeranye n'ubundi.» Yohana 1:14,16.

Iyo ntumwa yingize abizera kwiga Ivyanditswe Vyera, mu gutahura neza ivyo bategerezwa kugira ijambo ryamaho ibihe bidashira. Petero yatahuye ko mu buzima bw'umuntu wese azotsinda kw'iherezo hazoba ingorane n'amageragezwa; ariko yari azi kandi ko gutahura Ivyanditswe Vyera bizoshoboza uwuri mu bigeragezo kwibuka amasezerano azohumuriza umutima kandi agakomeza ukwizera Iyishobora vyose. Yavuze ati, «Abafise umubiri bose basa n'ivyatsi, kandi ubwiza bwabo bumeze nk'amashurwe y'ivyatsi. Ivyatsi biruma, amashurwe arahunguruka: ariko ijambo ry'Uhoraho ryamaho ibihe bidashira. Kandi iryo niryo jambo ry'ubutumwa bwiza twabwiwe. Nuko rero mwiyambure inzigo yose n'ubwenge bwose n'uburyarya n'ishari no kuvuga abandi nabi kwose, mumere nk'inzoya zivutse vuba, mwifuze amata y'umutima

adafunguye, kugira ngo abakuze: abashitse ku gakiza, asangwa mwarayumvirije mukumva yuko Umwami wacu agira neza.»

Benshi mu bizera Petero yandikiye amakete yiwe, harimwo ababa hagati y'abapagani, kandi vyose vyari bihagaze ku kuntu bazoguma ari abizigirwa ku muhamagaro w'ukwizera kwabo.
[273] Iyo ntumwa yabasiguriye imigisha bafise yo kuba abigishwa ba Kristo Yesu. «Ariko mweho muri ubwoko bwatoranijwe,» niko yanditse avuga, «abami n'abaherezi, muri ihanga ryera, abantu bashiriweho kuba inyegu yiharije, kugira ngo mukwize ishimwe ry'Iyabahamagaye, ikabakura mu mwiza, ikabashitsa mu muco wayo utangaje: kera nta bantu mwarimwo, ariko noneho muri abantu b'Imana. Kera ntimwaribwagirirwe imbabazi, ariko noneho mwarazigiriwe.«Abo nkunda, ndabinginga, ko muri inyambukira n'ingenzi mwirinde ivyifuzo vy'umubiri birwanya ubugingo; mugire ingeso nziza mu mahanga, kugira ngo, no ku vyo babavuga nabi nk'inkozi z'ibibi, ibikorwa vyanyu vyiza babona bize bitume bahimbaza Imana ku musi ibagendeye.»

Iyo ntumwa yerekanye neza inyifato abizera bategerezwa kugira imbere y'abategetsi b'igihugu: «Kubwo Umwami wacu, ubukuru bwose bwashizweho n'abantu mubugamburukire: ari umwami, kuko ari we gaheta; canke abakuru, kuko ari bo atuma guhana inkozi z'ibibi no gushima inkozi z'ivyiza. Ku ko ivyo Imana igomba ari uko ugukora neza kwanyu kuba agahomerabunwa ku bantu b'imburabwenge batagira ico bazi: ngo mube nk'abidegemvya, ariko atari ukugira umwidegemvyo wanyu igitwikirizo c'inzigo, ariko mube abagurano b'Imana. Mwubahe abantu bose; mukunde bene Data; mutinye Imana; mwubahe umwami.»

Abari abagurano bahanuwe kuguma ari abizigirwa kuri ba shebuja «mububashe rwose, atari ababagirira neza n'ababihanganira gusa, ariko n'abadadika. «Kuko igishimwa,» iyo ntumwa irasobanura, «umuntu namba ahanuwe n'ijwi ryo mu mutima gukora ivyo Imana igomba, yokwihanganira imibabaro ahowe ubusa. Mwokwihanganira gukubitwa ibipfunsi muhowe icaha, mwokwihaya iki? Ariko mwokwihanganira kubabazwa muhowe gukora neza, ivyo ni vyo mwahamagariwe, kuko na Kristo yababarijwe, akabasigarana icitegererezo, kugira ngo mugere ikirenge mu ciwe: We ata caha yakoze, kandi nta bugunge bwabonetse mu kanwa kiwe: yaratutswe, ariko ntiyabasubiza; yarababajwe, ntiyabahigira; ariko yiha Iyidaca

urwa nkunzi: Ubwiwe yikoreye ivyaha vyacu mu mubiri wiwe, abambwe ku giti, kugira ngo dupfuye ku vyaha tubeho ku kugororoka: inguma ziwe ni zo zabakijije. Kuko mwari mwarazimiye, nk'intama, ariko noneho mugarutse ku Mwungere w'ubugingo bwanyu, ari we nyene abujejwe.» Iyo ntumwa yahknuye abagore b'abizera kugira imvugo ityoroye n'ukwigerera mu kwambara no mu gushaza. Yabahanuye ati, «Ugushaza kwanyu ntikube ukwo ku rukoba kwo gutsiba umushatsi, canke ukwo kwambara izahabu canke ukwo kwambara impuzu nziza; ariko kube uko umuntu ahishijwe mu mutima, ugushaza kudashira, ni kwo mutima w'ubugwaneza utekereje, ni kwo kw'igiciro kinini imbere y'Imana.»

Iki cigwa kiraba abantu bo mu binjana vyose. «Muzobamenyera ku vyo bama.» Matayo 7:20. Ugushaza kwo mu mutima kw'ubugwaneza n'ugutekereza, gufise agaciro k'indenzarugero. Mu buzima bw'Umukristo w'ukuri ugushaza kwo hanze kwama na ntaryo kujanye n'umutima utekanye kandi wejejwe. «Umuntu ni yagomba kunkurikira,» ni ko Kristo yavuze, «ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire.» Matayo 16:24. Kwiyanka n'ukwitanga bizogaragaza Ubuzima Rukristo. Icemezo ko ivyifuzo vyahindutse bizobonekera mu nyambaro z'abagendera mu nzira yaciriwe uwaguzwe n'Umwami. Ni vyiza gukunda ibiteye igomwe kandi ni vyiza; ariko kandi Imana yifuza ko twokunda kuruta vyose ubwiza buruta ubundi, bwa bwiza butabora. Nta bwiza bwo ku mubiri bwonganya agaciro n'ubutore «n'umutima w'ubugwaneza kandi utekanye,» «impuzu nziza zera derere kandi zitanduye» [274]

(Ivyahishuwel9:14), aberanda bo mw'isi yose bazokwambara. Uwo mwambaro uzobagira beza kandi bakundwa hano, kandi kw'iherezo uzobabera ikimenyetso kibaha uburenganzira bwo kwinjira mu kirimba c'Umwami. Isezerano ryiwe ni iri, «Bazogendana nanje bambaye impuzu zera: kuko bibabereye.» Ivyahishuwe 3:4.

Aravye imbere n'amaso y'abavugishwa akabona ibihe vy'akaga ishengero rya Kristo rizokwinjiramwo, iyo ntumwa yahanuye abizera gushikama mu mageragezwa n'imibabaro. Yanditse ati, «Abo nkunda, umuriro uri hagati yanyu wo kubagerageza ntubatangaze, nk'uko mubonye akatabonetse.»Amageragezwa ari nju bigize indero itangwa mw'ishure rya Kristo, ngo bityorore abana b'Imana bibakureko imyanda y'isi. Amageragezwa ashikira abana bayo kubera Imana iriko irabayobora. Amageragezwa n'intambamyi ni

uburyo bwiwe yatoranije yo kubatoza indero, n'inzira yatoranije zo kubashikana ku ntsinzi. Uwusoma mu mitima y'abantu arazi intege nke zabo kuruta uko biyizi. Abona ko bamwe bafise ubushobozi, buyobowe neza, bwoshobora gukoreshwa mu guteza imbere igikorwa cayo. Mu burongozi bwayo izana abo bantu mu bibanza n'ibihe bitandukanye, ngo batahure utugeso tubi batazi. Ibaha akaryo ko gutsinda utwo tugeso, ikabafasha kuba ababereye igikorwa cayo. Kenshi Irareka imiriro y'imibabaro ikaka,kugira ngo batyororwe.

Imana yama na ntaryo izigama iragi ryayo. Ntiyemera ko imibabaro ishikira abana bayo, kiretse iyikenewe ku bwo ineza yabo yo muri iki gihe n'iyo mu bihe bidashira. Izotyorora ishengero ryayo, nk'uko Kristo yahumanuye urusengero igihe yakorera kw'isi. Ivyo yemera vyose ko bishikira abantu bayo mu buryo bw'ikigeragezo canke amakuba bigendereye kubafasha gushika ku kwubaha Imana kwimbitse kandi gukomeye ngo bashobire kujana imbere intsinzi z'umusaraba. Hari igihe mu buzima bwiwe Petero yigeze kwanka kubona umusaraba mu gikorwa ca Kristo. Igihe Umukiza ya-
[275] menyesha abigishwa imibabaro yiwe n'urupfu vyari vyegereje, Petero yamiye kure ati «Ntibikaze, Mwami: ntibize bikubeko na gato.» Matayo 16:22. Kubona inzira ya Kristo yategerezwa guca mu gahinda n'agakengerwe - vyatwaye umwanya muremure uwo mwigishwa kugirango amwemere. Ariko hagati muri iryo tanure yategerezwa kwiga ico cigwa. Noneho, bwa bwira bwiwe bwo gukora bumaze gucinyizwa n'ubusaza n'ibikorwa, yashoboye kwandika, ati «Abo nkunda, umuriro uri hagati yanyu wo kdbagerageza ntukabatangaze, nk'aho mubonye akatabonetse: ariko munezerezwe n'uko mufatanije n'imibabaro ya Kristo; kugira ngo no mu gihe co guhishurirwa kw'ubwiza bwiwe muze munezerwe muhimbarwe.»

Igihe yavugana n'abakuru b'amashengero ivyerekeye amabanga bajejwe nk'abungere b'ibisongerezi b'umukuku wa Kristo,iyo ntumwa yanditse iti, «Muragire ubusho bw'Imana bwo muri mwebwe, mutaburagira nk'abagoberewe, ariko mubikunze; ntimuburagirishwe no kurondera inyungu mbi, ariko muburagire mushize igikonyo; ntimuragire nk'abatwaza amanyama amasho mwagabanganirijwe, ariko mube ivyitegererezo vy'ubusho. Nuko umwungere Mukuru ni yerekanwa, muzokwambikwa mu mitwe igitsibo c'ubwiza kitazoshira.»

Abahawe kuba abungere b'ibisongerezi basabwa kuyobora neza ubusho bw'Umwami. Ibi ntibisobanura gutwaza igitugu, ahubwo ni ukubatera intege no kubakomeza no kubaremesha. Igikorwa c'Imana kirengeye amajambo y'insiguro; bisobanura igikorwa c'ubwizigirwa ku mu ntu bwite. Ishengero kw'isi rigizwe n'abagabo n'abagore bakora amakosa, bakeneye ukwihangana, akigoro mu mibabaro kugira ngo bigishwe kandi batozwe indero yo gukora bemewe muri ubu buzima, no mu buzima buzoza bakazoronka urugori rw'ubwiza n'ukudapfa. Abapasitori barakenewe-abungere b'intungane-batazokuyakuya abana b'Imana, batabaturubika, ariko bazobagaburira umutsima w'ubugingo-abantu mu buzima bwabo bumva buri musi ubushobozi bwa Mpwemu Yera kandi bafitiye urukundo rukomeye, rutikunda, abo bakorera.

Hari igikorwa gikeneye ubwenge ku mwungere, co gukora nk'uko yahamagariwe, kwemera agakengerwe, urwanko, ukwifuza n'ishari mw'ishengero, kandi azokenera gukora nka Kristo ngo atunganye ibintu vyose. Kugabisha ata guca iruhande birakenewe, ivyaha bitegerezwa gukankamirwa, amakosa agakosorwa, atari ku bwo igikorwa c'umuvugabutumwa ku ruhimbi, ahubwo ni igikorwa ca buri muntu wese. Umutima ukomantaye ushobora gufata ubu butumwa uko butari, maze umusuku w'Imana agatahurwa nabi canke akavugwa nabi. Ni yibul.e ko «ubwenge buva mw'ijuru, irya mbere buratunganye, kandi ni ubwo amahoro, burengenga, bukunda kugirwa inama, bwuzuye imbabazi n'imbuto nziza, ntibukekeranya, ntibugira uburyarya. Kandi imbuto zo kugororoka nzibibwa mu mahoro n'ababanguranya.» Yakobo 3:17,18.

Igikorwa c'ubutumwa bwiza ni «guserurira bose ububwiriza bw'ibanga ubwo ari bwo, ryari rihishijwe, uhereye kera hose, mu Mana.» Abanyefeso 3:9. Umuntu ni yinjira muri iki gikorwa agahitamwo akigoro ko kwitanga gato, akishinga gusigura gusa, hanyuma igikorwa co kugendera abantu akakiremeka uwundi muntu, Imana ntizokwemera ibikorwa vyiwe. Imitima Kristo yapfiriye iriko irahona ku bwo kubura abantu bakora igikorwa co gusanga abantu; kandi yafashe minenegwe umuhamagaro wiwe, mu kwinjira mu gikorwa c'ivugabutumwa, akanka gukora igikorwa ubusho bukeneye co kubasanga iyo bari. [276]

Umutima w'umwungere w'ukuri ni uwo kwiyibagira. Ariyibagira kugira ngo akore ibikorwa vyTmana. Mu kuvuga ijambo

ry'Imana no gukorera mu ngo z'abantu, atahura ivyo bakeneye, agahinda kabo, amageragezwa yabo; kandi, afatanije na wa wundi Mukuru mu kwikorera imitwaro, asangira nabo imibabaro yabo, akabaremesha mu kaga kabo, akamara inzara, maze akazana imitima yabo ku Mana. Muri iki gikorwa, umuvugabutumwa afashwa n'abamarayika bo mw'ijuru, kandi nawe nyene amurikirwa mu gutahura ukuri ngo aronke ubwenge bushikana ku gakiza. Mu vyo yahanuye abashinzwe igikorwa co kubungabunga ishengerc, iyo ntumwa yatanze ingingo ngenderwako zategerezwa gukurikizwa n'abantu bose bagize umuryango w'ishengero. Abakiri bato bo mu busho bategerezwa gukurikiza akarorero k'abakurambere babo mu kwicisha bugufi nka Kristo: «Namwe bukungu, mugamburukire

abashingantahe. Mwese mukenyere ukwicisha bugufi kugira ngo mukorerane: kuko Imana irwanya abibona, ariko abicisha bugufi ikabaha ubuntu. Nuko mwicishe bugufi muri musi y'ukuboko kw'ubushobozi, kugira ngo ize ibashire hejuru mu gihe gikwiye: muyikorere amaganya yanyu yose, kuko ibababara. Mwirinde ibiboreza, mwame mugavye: umurezi wanyu, ari we wa Murwanizi, agendagenda nk'intambwe yivuga, arondera uwo arotsa: mumurwanye mufise ukwizera gushikamye.»

Gutyo rero Petero yandikiye abizera mu gihe c'amageragezwa adasanzwe kw'ishengero. Benshi bari bamaze gusangira imibabaro ya Kristo, kandi bidatevye ishengero ryari rigiye guca mu gihe c'agahamo gateye ubwoba. Mu myaka mike yari imbere benshi mu bari bahagaze nk'abigisha n'abarongozi mw'ishengero bategerezwa gutanga ubuzima bwabo ku bwo ubutumwa bwiza. Bidatevye amabingira y'inkazi atabababarira umukuku yari yiteguye kwinjira. Ariko nta na kimwe muri ivyo vyategerezwa guca intege abashize ivyizigiro vyabo muri Kristo. Mu majambo yo kuremesha guhumuriza, Petero yayoboye ivyiyumviro vy'abizera abivana ku marushwa n'imibabaro izoza, abijana «kw'iragi ritabora, kandi ritanduye, kandi ridashira.» «Kandi Imana igira ubuntu bwose,» ni ko yasenze ashimitse, «yabahamagariye ubwiza bwayo budashira muri muri ICristo, ni nwaheza kubabazwa akanya galo, izobahisha, ibahe inkomezi. Ububasha bube ubwayo ibihe bitazoshira. Amen.»

## Ikigabane ca 52: Umwizigirwa Gushika Kw'iherezo [277]

*Iki Kigabane Gishimikiye kw'Ikete rya Kabir rya Petero*

Mw'ikete rya kabiri Petero yandikiye abari baronse «ukwizera kw'akaburarugero» kungana n'ukwiwe, iyo ntumwa yerekana umugambi w'Imana kw'iterambere rya kamere Rukristo. Yandika ati:«Ubuntu n'amahoro bigwire muri mwebwe, mubiheshejwe no kumenya Imana neza na Yesu Umwami wacu, kuko ubushobozi bw'ubumana bwayo bwaduhaye ivy'ubugingo no kwubaha Imana vyose, tubiheshwa no kumenya neza uwaduhamagarishije ubwiza bwiwe n'ingeso ziwe nziza: ivyo vyatumye aduha ivyo yasezeranye vy'akaburarugero, bihambaye cane: kugira ngo bibatere gusangira n'Imana akameremere kayo, mumaze gucika muva mw'iborero ryazanywe mw'isi no kwifuza. «Mbere kubw'iyo nyanduruko nyene, ubwanyu mushiruke umwete wose; ukwizera kwanyu mukwongerekw'ingeso nziza; ubwenge mubwongereko kwirinda; ukwirinda mukwongereko kwihangana; ukwihangana mukwongereko kwubaha Imana; Ukwubaha Imana mukwongereko gukunda bene Data; ugukunda bene Data mukwongereko urukundo. Kuko namba mugira ivyo, bikagwira, bituma mutaba abanyabute cank'ingumba ku vyo kumenya neza Umwami wacu Yesu Kristo.»

Aya majambo yuzuye inyigisho, kandi yerekana aho intsinzi ihagaze. Iyo ntumwa yereka abizera urwuririzo rw'iterambere Rukristo, aho intambuko imwe imwe yose yerekana gukura mu kumenya Imana, kandi mu kurwurira nta guhagarara kubamwo. Ukwizera, ingeso nziza, ubwenge, kwirinda, kwihangana, kwubaha Imana, gukunda bene Data, n'urukundo ni zo ntambwe zigize urwo rwuririzo. Dukizwa mu kwurira urwo rwuririzo ubudahengeshanya, tuduga intambwe ku yindi, gushika ku rugero rwo hejuru Kristo yadushiriyeho. Ku bw'ivyo, yatubereye ubwenge, n'ubugororotsi, n'ukwezwa, n'agakiza.Imana yahamagariye abantu bayo mu bwiza n'ingeso nziza kandi ibi bizogaragara mu buzima bw'abari mu bumwe nawe vy'ukuri. bamaze kuba abasangira ingabire y'ijuru,

bategerezwa gutera intambwe begera ugutungana, «bazigamwa n'ubushobozi bw'Imana kubw'ukwizera.» 1 Petero 1:5. Bihesha Imana icubahiro guha abana bayo ingeso nziza zayo. Yifuza kubona abagabo n'abagore bashika ku rugero rwo hejuru rw'ubweranda; kandi iyo ku bwo ukwizera bacakiye ubushobozi bwa Kristo, iyo binginga bamusaba gushitsa amasezerano yiwe adahinduka, kandi bakayagira ayabo, iyo bamugobera ngo abaronse ubushobozi bwa Mpwemu Yera, bazogirwa abuzuye muri We.

[278] Amaze kuronka ukwizera mu butumwa bwiza, igikorwa gikurikira c'umwizera, ni ukwongera ingeso nziza kuri kameremere yiwe, gutyo rero akoza umutima wiwe kandi agategurira ubwenge bwiwe kwakira ubwenge bw'Imana. Ubwo bwenge ni ishimikiro ry'ubumenyi nyakuri n'igikorwa nyakuri. Iki ni co kintu nyakuri gishobora kumurinda ibigeragezo; kandi ni co kintu conyene gishobora guhindura umuntu akagira kamere y'Imana. Mu kumenya Imana n'Umwana wayo Yesu Kristo, ni ho umwizera aronkera «ibintu vyose vy'ubuzima n'ukwubaha Imana.» Nta ngabire n'imwe nziza idahabwa umuntu yifuza vy'ukuri kuronka ukugororoka kw'Imana.

Kristo yavuze ati, «Ubu ni bwo bugingo budashira, ko bamenya wewe, Imana yonyene y'ukuri, n'uwo watumye, Yesu Kristo.» Yohana 17:3. Kandi uwavugishwa n'Imana Yeremiya yavuze ati: «Uku ni ko Uhoraho agize, at'Umunyabwenge yoye kwirata ubwenge bwiwe, canke umunyenkomezi ngo yirate inkomezi ziwe, canke umutunzi ngo yirate ubutunzi bwiwe: ariko uwirata, ni yirate ibi, ko yamenye, akantahura, yuko ndi Uhoraho nkunda kugira imbabazi no guca iziroranye n'izigororotse mw'isi: kukw'ivyo ari vyo bimpimbara, ni jewe Uhoraho mbivuze.» Yeremiya 9:23, 24. Ubwenge bw'umuntu ntibushobora gutahura neza ubwaguke n'uburebure bw'amajepfo, n'uburebure bw'amajaruguru bw'ibintu vy'Impwemu umuntu afise ubwo bwenge ashobora gushikako.

Nta n'umwe yari akwiye kunanirwa muri ubu buryo gushika ku gutungana kwa kamere Rukristo. Ku bwo ikimazi ca Kristo, vyose vyarateguwe ku mwizera ngo aronke ibintu vyose vy'ubuzima n'ukwubaha Imana. Imana iduhamagarira gushikira urugero rw'ubugororotsi kandi ishira imbere yacu akarorero ka kamere ya Kristo. Mu mubiri w'umuntu, atunganijwe no kurwanya ikibi adahengeshanya, Umukiza yerekanye ko mu gufashanya n'Imana, abantu bashobora gushikira ubugororotsi bwa kamere. Iki ni ice-

mezo Imana iduha, ko natwe, dushobora kuronka intsinzi yuzuye. Imbere y'umwizera hari ubushobozi bwo kuba nka Kristo. agamburuka inˆingo zose z'ivyagezwe vy'IMana. Iriko mu bushobozi bwiwe, umuntu ntashobora gushikira uru rugero. Ubweranda ijambo ry'Imana rivuga ko ategerezwa kuronka imbere y'uko ashobora gukizwa buvana n'igikorwa c'ubuntu bw'Imana igihe yiyoroheje akagamburuka kandi akumvira igikorwa ca Mpwemu w'ukuri. Ubugamburutsi bw'umuntu bushobora gutunganywa n'umubavu w'ukugororoka kwa Kristo, wuzuza ubumote bw'Imana igikorwa cose co kugamburuka. Uruhara rw'Umukristo ni ukwihangana mu kunesha ikosa ryose. Akwiye gusenga urudaca Umukiza ngo akize akajagari k'umutima wiwe ubogamiye ku caha. Ntafise ubwenge canke inkomezi zo kunesha ibi bikorwa n'Umwami Imana, kandi [279]
ivyo abiha abamuronderako ubufasha bicishije bugufi kandi bafise imitima imenetse.

Igikorwa co guhindura umuntu ava mu bubi akaja mu bweranda ni igikorwa ca misi yose. Buri musi Imana ikora ku bwo ukwezwa kw'umuntu, kandi umuntu asabwa gukorana na Yo, yihatira gukora ibiroranye. Ategerezwa kwongera ubuntu ku bundi; gutyo we agakora ku rwego rwo kwongereza, Imana igakorera ku rwego rwo kugwiza. Umukiza wacu yama yiteguye kwumva no kwishura isengesho ry'umutima umenetse, kandi ubuntu n'amahoro bigwizwa ku biwe b'abizigirwa. Abaha anezerewe imihezagiro bakeneye mu ntambara yabo barwanya ibibi bibasatira. Hari bamwe bagerageza kuduga ingazi y'iterambere Rukristo; ariko uko batera intambwe batangura kwizigira ubushobozi bw'umuntu, maze bidatevye bakibagira Yesu, Uwatanguje kandi Uwuzosozera ukwizera kwabo. Inkurikizi ni ukuneshwa-gutakaza ivyo bari bashitseko vyose. Ibi birababaje kubona abantu baruhira mu nzira, bakemerera Satani kubanyaga ubuntu bwa Kristo bahoze bagwiza mu mitima no mu buzima bwabo. Iyo ntumwa ivuga iti, «Uwutagira ivyo ni impumyi, abona ibiri hafi gusa, kandi yibagiye umwuhagiro w'ivyaha vyiwe vya kera.»

Intumwa Petero yari yaramenyereye cane ibintu vy'Imana. Ukwizera ubushobozi bw'Imana bwo gukiza kwari kwarakomeye ubwo imyaka yiyongera, gushika aho atahura atihenda ko ata gutsindwa gushoboka ku muntu agendera mu kwizera, aduga intabwe ku ntambwe, akomeza kuduga gushika ku gasongera k'urwuririzo

rushika no ku marembo y'ijuru. Mu myaka myinshi Petero yamye ahanura abizera akamaro ko gukura na ntaryo mu buntu no mu kumenya ukuri; none ubu, azi ko bidatevye azohamagarirwa kubabazwa ku bwo ukwizera kwiwe, yongeye kubereka amahirwe mburarugero ari mu biganza vy'umwizera wese. Mu kwizera kudahugumba, iyo ntumwa igeze mu zabukuru, yinginga bene Data kudatirigana kuri iyo ntumbero mu buzima Rukristo. Yabingize ati, «Mukwiye kurushiriza kugira umwete wo gukomeza ihamagarwa ryanyu, bo n'ugutoranywa: ni mwakora ivyo ntimuzotsitara na gatoya: kuko ni vyaba bityo, muzohabwa rwose kwinjira mu bwami budashira bwa Yesu Kristo, ni we Mwami n'Umukiza.» Ukwizera kw'agaciro! Ivyizigiro vy'ubwiza biri imbere y'umwizera, ubwo atera intambwe mu kwizera agana ku ngero zo hejuru z'ubugororotsi Rukristo!

Iyo ntumwa yarabandanije iti, «Ni co gituma imisi yose ntazotezura kubibutsa ivyo, naho mubizi mukaba mushikamye mu kuri kuri muri mwebwe. Ndiyumvira yuko nkwiye kubakangura mbibutsa, nkiri muri uru rusago. Kuko nzi yuko igihe co kwamburwa uru rusago rwanje kiza kuza gitebutse, nk'uk'Umwami wacu Yesu Kristo yamenyesheje. Ariko nzogira umwete, kugira ngo ni namara
[280] gutaha muze mushobore kwama mwibuka ivyo.»Iyo ntumwa yari ifise ubumenyi buhagije bwo kuvuga ivy' imigambi y'Imana ku bantu; kuko mu misi Kristo yakoreye mw'isi yari yabonye kandi arumva vyinshi vyerekeye ubwami bw'Imana. Yibukije abizera ati, «Kuko tutakurikiye imigani yaremwe n'akenge, hamwe twabamenyesha ubushobozi bw'Umwami Yesu Kristo no kuzoza kwiwe, ariko ni uko twiboneye n'amaso yacu icubahiro ciwe gihambaye. Kuko yahawe n'Imana Data wa twese ishimwe n'ubwiza, ah'ijwi rivuzwe n'ubwiza bukomeye cane ryamushikako, rikavuga, ngo Nguyu Umwana wanje nkunda akampimbara. Kandi iri jwi ryavuye mw'ijuru twararyumvise igihe twari kumwe na We ku musozi wera.»Ariko naho ivyizigiro vy'abizera vyari ivyo ukuri, hari hakiri ibindi vy'ukuri mu gushinga intahe kw'ivyo abavugishwa n'Imana, ivyo ukwizera kwa bose gutegerezwa gushingirako. Petero yemanze ati, «Ariko turafise ijambo ryavugishijwe, ryakomejwe kurushiriza; mugira neza ko murishirako umutima, ni nk'itara ryakira ahacuze umwiza, rigakesha ijoro, rikageza ah'ikinyenyeri co mu gaturuturu kizobandurira mu mitima yanyu: irya mbere mukwiye kumenya , ni

uko ata jambo ry'abavugiswa n'Imana ryo mu vyanditswe rishobora gusobanurwa nk'uko umuntu avyigombera, kuko ata jambo ry'abavugishwa n'Imana ryazanywe no kugomba kw'umuntu, ariko abantu bavuga ivyava ku Mana, barongowe na Mpwemu Yera.»

Naho yashize hejuru iryo «jambo ry'ukuri ryavugishijwe» nk'indongozi mu bihe vy'akaga, iyo ntumwa yagabishije ku mugaragaro ishengero ngo ryirinde umuco w'ukuvugishwa kw'ibinyoma, uzoshirwa hejuru «n'abigishwa b'ibinyoma,» bazokwinjiza mu mpisho «inyigisho zitera guhona, bazokwihakana na Shebuja yabaguze.» Abo bigisha b'ibinyoma, bazokwaduka mw'ishengero kandi benshi muri bene Data mu kwizera bazobemera nk'abanyakuri, iyo ntumwa ibagereranya «n'amasoko akamye, kandi ni ibipfungu bikubebwa n'igihuhuta, barindirijwe umwiza w'umuzitanya.» Yavuze yemanga ati, «ivyo hanyuma vyabo birusha ivya mbere kuba bibi. Icobaye ciza kuri bo, iyaba batigeze kumenya inzira yo kugororoka, hako basubira inyuma, bamaze kuyimenya, bagata icagezwe cera bahawe.» Aravye kure ku gihe c'umuhero, Petero yahumekewe kwandika ingene ibintu bizoba biri mw isi imbere gato y'ukugaruka kwa Kristo. Yanditse ati, «Mu misi y iherezo hazoza abacokoranyi bacokorana bakurikira ukwifuza kwabo, babaza, bati Isezerano ryo kuza kwiwe riri hehe se? Kuko uhereye aho ba sogokuruza basinziriye, vyose bihora uko vyamye, uhereye kukuremwa kw isi.» Ariko «Aho bazoba bavuga, bati hari amahoro, nta nkomanzi; ni ho uguhona kuzobazako giturumbuka.» 9 Ab'i Tesalonike 5:3. Ariko si bose bazofatwa n'umutego w'ubuhendanyi bwa Sataru. Ubwo impera y ivy isi vyose izoba yegereje, hazoba abizigirwa bazoshobora gutahura ibimenyetso vy'ibihe. Igihe umugabane munini w'abiyita abizera bazohakana ukwizera kwabo ku bwo ibikorwa vyabo, hazobaho amasigarira azokwihangana gushika kw'iherezo. [281]

Petero yagumije ku muzirikanyi ivyizigiro vy'ukugaruka kwa Kristo, kandi yijeje ishengero ko Umukiza azoshitsa isezerano ryiwe, «Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana i wanje.» Yohana 14:3. Ku bari mu mageragezwa kandi b'abizigirwa ukugaruka kwa Kristo kwasa n'uko gutevye, ariko iyo ntumwa yabemeje : «Umwami Imana ntitebeje isezerano ryayo, nk'uko bamwe biyumvira ko iritevya; ariko yihanganira mwebwe, ntigomba ko hagira abahona, ariko igomba ko bose bihana. Ariko umusi

w'Umwami wacu uzoza nk'igisuma, aho amajuru azovaho, hakaba n'ukwasana guhambaye, ivy'itanguriro vyose bigashongeshwa n'ikibengebenge gikaze, isi n'ibikorwa biri muri yo bigatongoka. «None, ko ivyo vyose bizoshonga bityo, mukwiye kumera mute mu ngeso zera no mu kwubaha Imana, no mu kurereka ukuza kw'umusi w'Imana muwuhahamiye, uzotuma amajuru ashongeshwa no gusha, kandi ivy'itanguriro bikayagishwa n'ikibengebenge gikaze? Ariko nk'uko yasezeranye, tureretse ijuru risha n'isi nsha, ivyo kugororoka kuzobamwo.

«Nico gituma, abo nkunda, kuko mureretse ivyo, mukwiye kugira umwete wo kuzosangwa mu mahoro, mutagira ikirabagu, mutariko umugayo imbere yiwe. Mwiyumvire yuko kwihangana kw'Umwami wacu ari agakiza;'-nk'uko mwene Data akundwa Paulo yabandikiye, uko ubwenge yahawe bungana.... None mweho, abo nkunda, kuko musanzwe muzi ivyo, mwirinde ngo ntimutwarwe n'ubuzimire bw'abatirinda, mugata ugushikama kwanyu. Ariko mukurire mu buntu bwa Yesu Kristo Umwami wacu n'umukiza.» Ku bwo integuro y'Imana, Petero yemerewe kurangiriza igikorwa ciwe i Roma, aho umunyororo wiwe wategetswe n'umwami Nero, umengo mu gihe Paulo yafatwa ubwa nyuma. Nuko rero izo nararibonye zibiri zari zaratandukanye mu gihe kirekire ku bw' ibikorwa vyabo, zategerezwa gushinga intahe yazo ku bwa Kristo mu mugwa mukuru w'isi yose, kandi ku butaka bwawo bategerezwa gusesaho amaraso yabo nk'imbuto izovamwo umwimbu munini w'aberanda n'abapfa bazira ukwizera kwabo. Uhereye igihe yongera kwemerwa inyuma yo kwihakana Kristo, Petero yari yihanganiye akaga ata bwoba kandi yari yerekanye ubutwari bw'igitangaza mu kwamamaza Urivukiza yabambwe, yazutse kandi akaduga mw'ijuru. Ubwo yari arambaraye mu kumba k'ibohero, yibutse ya majambo Kristo yari yamubwiye: «N'ukuri, n'ukuri ndakubwire, Ukiri umusore, warikenyeza, ukaja aho ugomba: ariko aho uzosazira, uzoramvura amaboko, uwundi agukenyeze, akujane aho utagomba.» Yohana 21:18. Gutyo Yesu yari yamenyesheje uwo mwigishwa uburyo azopfa, n'ingene azoramvura amaboko ku musaraba.

[282] Petero, nk'Umuyuda n'umunyamahanga, yaciriwe urwo gukubitwa inkoni n'ukubambwa. Yiyumviriye ivy'urwo rupfu ruteye ubwoba, iyo ntumwa yibutse icaha yakoze mu kwihakana Yesu mu gihe ciwe c'amageragezwa. Ubwo ubwa mbere atari yiteguye kwemera

umusaraba, ubu ho abona ko ari umunezero gutanga ubuzima bwiwe ku bw'ubutumwa bwiza, atinya gusa ko, we yari yihakanye Umwami wiwe, yohava aterwa iteka ryo gupfa nk'uko bishe Shebuja. Petero yari yarihanye vy'ukuri kandi yari yarababariwe na Kristo, nk'uko vyerekanwa mu gikorwa yamujeje co kugaburira intama n'imyagazi y'intama y'ubusho. Ariko ntiyashobora kwibabarira namba. Mbere n'iciyumviro c'imibabaro n'akabonge vya nyuma ntivyashobora kugabanya agahinda kiwe n'ukwihana. Ineza ya nyuma yasavye, yinginze abagiye ku mwica ko bomubamba acuramye. Babimukoreye nk'uko yabisavye, maze iyo ntumwa rurangiranwa ipfa gutyo.

## Ikigabane ca 53: Yohana Mukundwa

Yohana amenyekana mu zindi ntumwa nka «wa mwigishwa Yesu yakunda.» Yohana 21:20. Bisa n'uko yagize amahirwe cane yo kugirana ubucuti bukomeye na Kristo, kandi yaronse Umukiza yamweretse ibimenyetso vyinshi ko amwizeye kandi amukunda. Yabaye umwe muri ba bandi batatu bemererwa kubona ubwiza bwa Kristo igihe yahinduka ukundi ku musozi n'ukubona imibabaro yiwe i Getsemane, kandi ni nawe Umukiza yaragije nyina wiwe muri ya masaha ya nyuma y'agahinda ari ku musaraba. Igishika Umukiza yari afitiye uwo mwigishwa mukundwa yaracishuwe n'inkomezi zose zo kwitanga. Yohana yiboheye kuri Kristo nk'uko umuzabibu umase ku giti kinini. Ku bwo gukunda Umwigisha wiwe, yarindutse akaga k'ikibuga c'imanza yegera ku musaraba. Amaze kwumva inkuru ko Kristo yazutse, yirukanze ku mva, afise umwete uruta uwa ya nshigwarimenetse Petero. Urukundo rw'igitangaza n'ukwitanga kuzira ukwikunda vyigaragaje mu buzima no muri kamere ya Yohana bitanga ivyigwa vy'imburarugero kw'ishengero rya Kristo. Yohana ntiyari yavukanye kamere yo gukundana yabonetse mu misi ya nyuma y'ubuzima bwiwe. Ku bwa kamere ya kimuntu yari afise agasembwa gakomeye. Ntiyari gusa umuntu yibona, yiyemera, kandi akiranira icubahiro, ahubwo yari inkazi, afise agatima ko kwihora uwamugiriye nabi. We na mwene wabo babita «bene nkuba.» Gukaza ishavu, kwifuza kwihora, umutima wo kuvuga abandi, ivyo vyose vyari mu ri uwo mwigishwa mukundwa. Ariko musi y'ivyo vyose, Umwigisha akaba n'Imana yasomyemwo umutima w'urukundo rukomeye rutagira uburyarya. Yesu yakankamiye ukwirondera kwiwe, aca intege ukurondera ubukuru kwiwe, agerageza [283] ukwizera kwiwe. Ariko yamuhishuriye ico umutima wiwe wifuza-ubutore bw'ubweranda, inkomezi z'urukundo ruhindura umuntu.

Udusembwa two muri kamere ya Vohana twigaragaje mu bihe vyinshi mu migenderanire yiwe n'Umukiza. Igihe kimwe Kristo yarungitse intumwa ngo zimwitangire imbere mu kigwati c'Abasamariya, zisaba abantu baho ngo bamutegurire amazimano

we n'abigishwa biwe. Ariko igihe Umukiza yegereza ico gisagara, bigaragara yuko yifuje guca i Yerusalemu. Ivyo vyateye ishari Abasamariya, maze aho kumusaba ngo agume iwabo, bamwima ikaze ryari guhabwa umuntu arengana uwo ari we wese. Yesu ntiyigera ategeka abantu ngo bamwakire, kandi Abasamariya batakaje imihezagiro bari kuronka iyo bamusaba ko yobabera umushitsi. Abigishwa bari bazi ko wari umugambi wa Kristo guhezagira Abasamariya mu kuba hamwe na bo; kandi ubukonje, ishari, n'urupfasoni ruke beretse Umwigisha wabo vyarabatangaje kandi birabashavuza. Yakobo na Yohana cane cane ni bo bahahagaze. Kubona uwo bubaha birenze urugero akengerwa gutyo, vyasa nk'uko ari icaha gihambaye cane ku buryo categerezwa guhanwa buno nyene. Mu mwete wabo bavuze, bati «Mwami, ugomba ko tubarira umuriro ngo utibuke uve mw'ijuru, ubayigize, nk'uko Ehya yakoze?» Bakubitiza agatima mpembero ku kurimbuka kwa za ntwazangabo z'Abasamariya n'ingabo zabo zari zarungitswe gufata Eliya. Bakubiswe n'inkuba kubona Yesu ababajwe n'amajambo yabo, mbere barushirizaho kubabara igihe bumva abakankamira, ati: «Erega ntimuzi umutima wanyu uko usa; kuko Umwana w'umuntu ataje guhonya ubugingo bw'abantu, ariko yaje kubukiza.» Luka 9:54-56.

Nta biri mu migambi ya Kristo kugobera abantu ngo bamwakire. Ni Satani, n'abantu bakoreshwa n'umutima wiwe, barondera gutegeka umutima-nama. Mu kwiyoberanya mu mwete wo kurondera ubugororotsi, abantu bakorana n'abamarayika babi rimwe na rimwe bazana unibabaro ku bantu nkabo, ngo babategeke kwemera ivyiyumviro vyabo vy' idini; ariko Kristo yama na ntaryo yerekana ikigongwe, arondera kubakwegesha urukundo rwiwe. Ntashobora kwemera ihiganwa mu bantu, canke ngo yemere umuntu akorera abami babiri; yifuza gusa uwumukorera bivuye ku mutima, uwumuhebera umutima asunitswe n urukundo. Ikindi gihe naco Yakobo na Yohana basavye nyina wabo ko yobasabira kuronka icicaro co hejuru mu bwami bwaKristo.Batitayeho ingene Kristo yari yababwiye adahengeshanya kamere y'ubwami bwiwe, abo bigishwa b'imiyabaga bari bagifise ivyizigiro vya Mesiya yoje gufata ubutegetsi kandi akimika ubwami buhuye n'ivyifuzo vy'abantu. Uwo muvyeyi yifuriza abahungu biwe ikibanza c'icubahiro muri

ubwo bwami, yasavye ati, «Bivuge aba bahungu banje babiri baze bicare umwe i buryo bwawe uwundi i bumoso mu bwami bwawe.»

[284] Ariko Umukiza yamwishuye ati, «Ntimuzi ico musaba. Mwoshobora kunywera ku gikombe jewe ngira nywereko, no kubatizwa umubatizo ngira mbatizwe?» Bibutse ya majambo yiwe atangaje yerekeye amageragezwa n'imibabaro, yamara bishura badakekeranya bati, «Turashobora.» Babona ko ari agateka kadasanzwe kwerekana ubuyoboke bwabo mu gusangira ibizoshikira Umwami wabo vyose. Kristo yababwiye ati, «Igikombe canje koko muzokinywerako, kandi muzobatizwa umubatizo ngira mbatizwe,»-imbere yiwe umusaraba mu gishingo c'intebe y'ubwami, abanyakibi babiri hamwe na We, umwe i buryo uwundi i bumoso. Yakobo na Yohana bategerezwa gusangira imibabaro n'Umwigisha wabo-umwe, azokwicishwa inkota mu kanya gato kari imbere; uwundi, azorusha abigishwa bose gukurikira Umwigisha wiwe mu bikorwa n'ibitutsi n'agahamo. Arabandanya ati, «Ariko gutanga ivyicaro i buryo bwanje n'i bumoso, si ivyanje, atari abo Data yabiteguriye.» Matayo 20:21-23.

Yesu yatahuye imvo zatumye basaba ivyo, niko gukankamira ubwibone n'ukurondera ivyubahiro vy'abo bigishwa babiri: «Abaganwa b'amahanga bayatwaza amanyama, kandi n'abakuru bayo bayagirako ububasha. Ariko muri mwebwe si ko biri. Ariko uwugomba kuba mukuru muri mwebwe aze abe umukozi wanyu; kandi uwugomba kuba uwo imbere aze abe umukozi wanyu, nk'uko Umwana w'umuntu atazanywe no gukorerwa, atari ugukorera abandi, no gutanga ubugingo bwiwe kw'incungu ya benshi.» Matayo 20:25-28. Mu bwami bw'Imana, icubahiro ntigitangwa ku bwo ubutoni. Ntigikiranirwa, canke ngo bagihe uwo bishakiye ata co bafatiyeko. Bivana na kamere y'umuntu. Urugori n'intebe ni ibimenyetso vy'ico umuntu yashitseko-ibimenyetso vy'intsinzi kuri kameremere biciye mu buntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo. Kera inyuma y'aho, igihe Yohana yari yagiranye na Kristo imishikirano mu gusangira imibabaro yiwe, Umwami Yesu yamuhishuriye ibikenewe ngo umuntu yegere ubwami bwiwe. Kristo yavuze ati, «Uwimesha, nzomuha kwicarana na Daita ku ntebe yiwe.» Ivyahishuwe 3:21. Uwuhagarara hafi cane ya Kristo azoba uwanyoye cane ku mutima w'urukundo rwitanga,- urukundo «rutihayagiza, rutihimbaza,... rutarondera ivyarwo, ruticiraho, rutiyumvira ikibi.»

(1 Ab'i Korinto 13:4, 5) Urukundo rusunika umwigishwa nk'uko rwasunika Uwami wacu, gutanga vyose, kubaho no gukora no kwitanga gushika no ku rupfu, ku bwo agakiza k'abantu.

Ikindi gihe mu gihe c'ibikorwa vyabo vyo kuvuga ubutumwa kw'isi, Yakobo na Yohana bahwanye n'umuntu, naho atari azwi nk'umwigishwa wa Kristo, yariko arasenda abadayimoni mw'izina ryiwe. Abo bigishwa babujije uwo muntu gukora kandi biyumvira ko bagira neza mu gukora batyo. Ariko igihe bashikana ico kibazo imbere ya Kristo, yarabakankamiye ati, «Ntimumubuze, kuko ata muntu azokora igitangaza mw izina ryanje, azoshobora guca amvuga [285]
nabi,» Mariko 9:39. Nta n umwe mu buryo ubwo ari bwo bwose yerekana ko acuditse na Kristo yategerezwa kwigizwayo. Abigishwa ntibategerezwa gukuyakuya umutima utabona kure, w'amacakubiri, ahubwo bategerezwa kugaragaza wamutima wo gushikira bose, bari babonye mu Mwigisha wabo. Yakobo na Yohana bari bibwiye ko mu kubuza uwo muntu barwanira agateka k'Umwami wabo; ariko batanguye kubona ko babiterwa n'ishari. Baremeye ikosa ryabo kandi bemera gukosorwa.

Ivyo vyigwa vya Kristo, bishira imbere ubugwaneza n'ukwicisha bugufi n'urukundo nk'ibintu ntabanduka bifasha gukurira mu buntu no kwemerwa mu gikorwa ciwe, vyari ivyo agaciro kanini kuri Yohana. Yabitse mu mutima icigwa buri cigwa kandi arondera na ntaryo gutegeka ubuzima bwiwe gukurikiza ako karorero k'Imana. Yohana yari yatanguye gutahura ubwiza bwa Kristo-atari ubwiza bwo kurata ubutunzi n'icubahiro vy'isi n'ubushobozi yari yarigishijwe kwizigira, ahubwo «ubwiza nk'ubwo Umwana w'ikinege ava kwa Se, yuzuye ubuntu n'ukuri.» Yohana 1:14. Uburebure n'inkomezi z'urukundo Yohana yari afitiye Umwigisha wiwe si vyo vyatumye Kristo amukunda, ahubwo vyari inkurikizi y'urwo rukundo. Yohana yifuza kuba nka Yesu, kandi biciye mu gikorwa c'urukundo rwa kristo gihindura, yahindutse umugwaneza kandi yiyorosha. Ukwikunda kwiwe kwahishijwe muri Kristo. Yohana yarushije bagenziwe bose mu kwihqmbirira ku bushobozi bw'ubwo buzima butangaje. Avuga ati, «Ubwo bugingo bwarerekanywe, kandi turabubona.» Kuko ibibogaboga muri We ari vyo twahaweko twese n'ubunhi bugerekeranye n'ubundi.» 1 Yohana 1:2; Yohana 1:16. Yohana yari azi Umukiza mu nzira yo kubana na We. Ivyigwa vy'Umwigisha wiwe vyiyanditse mu mutima wiwe. Igihe yashin-

gira intahe ubuntu bw Umukiza, unvugo yiwe yoroheje yagaragaza urukundo rwabogaboga mu buzima bwiwe bwose. Urukundo rukomeye yari afitiye Kristo ni rwo rwatuma yifuza imisi yose kuba i ruhande yiwe. Umwigisha yakimda ba bandi cumi na babiri bose, ariko Yohana ni we yari afise umutima wakira kuruta abandi. Yari muto kuruta abandi, maze yugururira umutima wiwe Yesu nk'umwana yizigira umuvyeyi wiwe. Gutyo, yagiranye na Kristo imishikirano ikomeye, kandi Umukiza yacishije muri we inyigisho zihambaye zo mu vy'impwemu yashikirije abantu.

Yesu akunda abaserukira Data, kandi Yohana yashobora kuvuga ivyo urukundo rwa Data kuruta abandi bigishwa bose. Yahishuriye abantu ivyo we ubwiwe yiyumva mu mutima, yerekana muri kamere yiwe uko Imana imeze. Ubwiza bw'Umwami Imana bwaboneka mu maso hiwe. Ubutore bw'ubweranda bwari bwaramuhinduye bwakayanganira mu maso hiwe bufise ugukayangana kwa Kristo. Mu gusenga no mu rukundo, yitegereje Umukiza gushika aho gusa
[286] na Kristo no kugira ubumwe na We bihinduka icifuzo ciwe rudende, kandi muri kamere yiwe hagaragaye kamere y'Umwigisha wiwe. Yavuze ati, «Murabe urukundo uko rungana Data wa twese yatugiriye, ko twitwa abana b'Imana .... Abo nkunda, none turi abana b'Imana, ariko uko tuzomera ntikurahishurwa: ico tuzi ni uko, Yesu niyahishurwa tuzosa na We, kuko tuzomuraba uko ari.» 1 Yohana 3:1, 2.

## Ikigabane ca 54: Icabona C' Intamuheba

*Iki Kigabatte Gishimikiye ku Makete ya Yoltana*

Kristo amaze kuduga mw'ijuru, Yohana yahagaze nk'umukozi w'intwari n'umwizigirwa ku bw'Umwigisha wiwe. Hamwe n'abandi bigishwa, yashimishijwe n'ugusukwa kwa Mpwemu ku musi wa Pentekote, kandi yabandanije n'umwete n'ubushobozi busha kubwira abantu amajambo y'ubugingo, arondera kurongora ivyiyumviro vyabo kuri wa wundi ataboneka. Yari umusiguzi akomeye cane, w'ubwira n'umwete mwinshi. Mu majambo ateye igomwe n'ijwi riririmba yigishije amajambo n'ibikorwa vya Kristo, avuga mu buryo bukora ku mitima y'abamwumviriza. Amajambo yiwe yoroshe, ubushobozi bw'ukuri yavuga, n'ishaka ryaranga inyigisho ziwe, vyamuha uburenganzira bwo gushikira abantu b'ubwoko bwose.

Ubuzima bw'iyo ntumwa bwari buhuye n'inyigisho ziwe. Urukundo akunda Kristo rwaka mu mutima wiwe, rwamutuma akora n'umwete, atiziganya ku bwo abantu, na cane cane bene Data bo mw'ishengero rya Kristo. Kristo yari yategetse abigishwa ba mbere gukundana nk'uko yabakunze. Gutyo rero basabwa gushingira intahe abari mw'isi ko Kristo yubatswe muri bo, ivyizigiro vy'ubwiza. Yababwiye ati, «Ndabaha icagezwe gisha, ni mukundane; nk'uko nabakunze, abe ari ko namwe mukundana. Yohana 13:34. Igihe aya majambo yavugwa, abigishwa ntibashobora kuyatahura; ariko bamaze kwibonera imibabaro ya Kristo, amaze kubambwa kandi akazuka, kandi akaduga mw'ijuru, kandi

Mpwemu Yera amaze kubazako ku musi wa Pentekote, baratahuye neza urukundo rw'Imana n'ubwoko bw'urukundo bategerezwa kugiriranira. Yohana rero yashobora kubwira abigishwa bagenziwe ati: «Iki ni co kitumenyesha urukundo, ni uko uwo yatanze ubugingo bwiwe kubwacu: natwe dukwiye gutanga ubugingo bwacu kubwa bene Data.» Mpwemu Yera amaze kumanuka, igihe abaigishwa bagenda kwamamaza Umukiza ari muzima, icifuzo

cabo rudende cari agakiza k'imitima. Banezerejwe n'akanovera k'ubumwe bw'abera. Bari abagwaneza, bitwararika, biyanka, biteguye kugira akigoro kose ku bwo ukuri. Mu migenderanire
[287] yabo ya buri musi, bagaragaza urukundo Kristo yari yabategetse. Mu majambo atarimwo ukwikunda n'ibikorwa, bagerageza kwatsa urwo rukundo mu yindi mitima. Urwo rukundo abizera basabwa kuruzigama. Bategerezwa kuja imbere bagamburukira ata gahato ico cagezwe gisha. Bategerezwa kwomatana na Kristo ngo bashobozwe gushitsa ivyo abasaba vyose. Ubuzima bwabo bwategerezwa gushimagiza ubushobozi bw'Umukiza ashobora kubatsindanishiriza ku bwo ubugororotsi bwiwe.

Ariko buhoro buhoro ibinhi vyarahindutse. Abizera batanguye kubona udusembwa mu bandi.. Mu kugumiza amaso ku makosa, mu guha ikibanza amajambo y'agacokoro, bibagiye Umukiza n'urukuncfo rwiwe. Baciye bashira akatuzo ku biboneka hanze mu nteguro zo gusenga, cane cane ku vyerekeye ivyiyumviro vy'ubwenge aho kuraba cane ishirwa mu ngiro ry'ukwizera. Muw'ishaka ryabo ryo gucokora abandi, biyobagije amakosa yabo ubwabo. Batakaje urukimdo rwa kivandimwe, Kristo yari yabategetse, kandi ikibabaje kuruta vyose, ntibatahura ko bazimiye. Ntibabona ko umunezero n'akamwemwe biriko birashira mu buzima bwabo kandi ko, kubera bugaraniye urukundo rwTmana hanze y'imitima yabo, bidatevye bazogendera mu mwiza.

Yohana, abonye urukundo rwa kivandimwe ruriko rurakabirana mw'ishengero, yinginze abizera ngo barondere na ntaryo urwo rukundo. Amakete yiwe yandikiye amashengero yuzuye iki ciyumviro. Yandika ati, «Abo nkunda, dukimdane: kuko urukundo ruva >ku Mana; umuntu wese akundana yavyawe ri'Imana, kandi azi Imana. Uwudakimdana, ntazi Imana, kuko Imana ari urukundo. Iki ni co caseruye urukundo rw'Imana muri twebwe, ni uko Imana yarungitse Umwana wayo w'ikinege mw'isi, kugira ngo duheshwe ubugingo na We. Iki ni co kirimwo urukundo, si uko twebwe twakunze Imana, ariko ni uko ari yo yadukunze, igatuma Ucnwana wayo kuba impongano y'ivyaha vyacu. Abo nkunda, ko Imana yadukunze ityo, natwe dukwiye gukundana.»

Ku buryo bumwe budasanzwe urwo rukundo rutegerezwa kugaragazwa n'abizera, iyo ntumwa yandika iti, «Ndabandikira icagezwe gisha, kandi ico ni ico ukuri muri We no muri mwebwe:

kuko umwiza uriko urashira, umuco w'ukuri umaze kwaka. Uwuvuga, ko ari mu muco, akanka mwene Data wundi, aba akiri mu mwiza na bugingo n'ubu. Uwukunda mwene Data wundi aguma mu muco, nta gitsitaza kiri muri we. Ariko uwanka mwene Data wimdi ari mu mwiza, kandi agendera mu mwiza, ntazi iyo aja, kuko umwiza wamuhumishije amaso.» «Ubu ni bwo butumwa mwumvise uhereye mbere na mbere, ngo dukundane.» «Uwudakundana yama mu rupfu. Uwanka mwene Data wundi ni umwicanyi: kandi murazi yuko ata mwicanyi yogira ubugingo budashira ngo bugume muri we. Iki ni co kitumenyesha urukundo, ni uko uwo yatanze ubugingo [288]
bwiwe ku bwacu: natwe dukwiye gutanga ubugingo bwacu ku bwa bene Data.»

Si abarwanya ishengero bo mw'isi bariterera mu kaga cane. Ni ububi bubundikirwa mu mitima y'abizera bwica cane kandi bukabera intambamyi iterambere ry'igikorwa ca Kristo. Nta yindi nzira vy'ukuri ishobora kwica ubuzima bw'impwemu nko gukuyakuya ishari, urwikeko, kurondera amakosa mu bandi, n'ukwiyumvira abandi nabi. Ku rundi ruhande, ikimenyamenya ko Imana yarungitse Umwana wayo mw'isi ni kubaho kw'umwumvikano n'ubumwe hagati y'abantu batandukanye bagize ishengero. Ni amahirwe ku bigishwa ba Kristo gutanga iki gishingantahe. Ariko kugira ngo babikore, bategerezwa kwisunga itegeko rya Kristo. Kamere zabo zitegerezwa guhuza na kamere ya Kristo n'ubugombe bwabo bugahuza n'ubwiwe.

Kristo yavuze ati, «Ndabaha icagezwe gisha: nimukundane; nk'uko nabakunze abe ari ko namwe mukundana.» Yohana 13:34. Mbega amajambo atangaje; ariko, ntiworaba ingene ari gake bayakurikiza! Mw'ishengero ry'Imana uyu musi, birateye agahinda ingene urukundo rwa kivandimwe rwabuze. Benshi mu bavuga ko bakunda Umukiza ntibakundana. Abatizera bariko baritegereza ngo barabe namba urukundo rw'abiyita Abakristo rukora mu buzima bwabo igikorwa co kubeza; kandi babona badatevye utunenge muri kamere yabo, ingene ibikorwa vyabo bibavuguruza. Abakristo ntibahe akaryo umurwanizi ko gushobora kuvuga ngo, Raba ingene aba bantu bahagaze musi y'ibendera rya Kristo bankana. Abakristo bose bagize umuryango umwe, bose ni abana ba Data wa twese wo mw'ijuru, bafise ivyizigiro vy'umugisha bimwe vy'ukudapfa. Bategerezwa gufatanywa n'imigozi y'ubumwe n'urukundo.

Urukundo rw'Imana ruhamagara cane imitima yacu igihe rudusaba kugaragaza za mpuhwe Kristo yerekanye. Ko umuntu gusa afise urukundo rutikunda ari we akunda Imana vy'ukuri. Umukristo w'ukuri ntazokwemera ko umuntu ari mu kaga n'ubukene agenda atagabishijwe, atitaweho. Ntazirengagiza abantu bari mu makosa, ngo abareke badobere mu mibabaro no gucika intege canke ngo bagwe mu rubuga rw'intambara ya Satani.

Abatigeze bamenya urukundo nikwega abantu rwa kristo ntibashobora kuyobora abandi kw'isoko y'ubugingo. Urukundo rwa Kristo mu mutima ni ubushobozi bugobera, buyobora abantu kumuhishura mu biganiro, mu mutima w'urukundo n'ikigongwe, n'ukuzamura ubuzima bw'abo bahwana nabo.Abakozi b'Abakristo baroranirwa mu twigoro twabo bategerezwa kumenya Kristo; kandi kugira ngo bamumenye, bategerezwa kumenya urukundo rwiwe. Mw'ijuru urugero rwabo rwo kumenya ko babereye nk'abakozi, rupimwa n'ubushobozi bwabo bwo gukurida nk'uko Kristo yakunze,
[289] no gukora nk'uko yakoze. Iyo ntumwa yar.dikc. iti, «Ktidukunde mu majambo, ariko mu bikorwa no mu kuri.» Ubutimgane bwa kamere bushikirwa iyo igishika co gufasha no guhezagira abandi cama kidudubiza mu mutima. Ni urwo rukundo rwuzuye mu mutima w'umwizera rumutuma aba akanovera k'ubuzima gatanga ubuzima kandi kagatuma Imana ihezagira igikorwa ciwe.

Gukunda Imana kuruta vyose n'ugukunda abandi kuzira ukwikimda-ni yo ngabire iruta zose Data watwese wo mw'ijuru ashobora gutanga. Uru rukundo si urwo igihababu, ahubwo ni itegeko ry'Imana, ubushobozi bwamaho. Umutima utitanga ntushobora kwamurwamwo urwo rukundo. Ruboneka gusa mu mutima Yesu aganzamwo. «Tumukunda kuko yabanje kudukunda.» Mu mutima wagizwe musha n'ubuntu bw'Imana, urukundo ni rwo rutegeka ivyo dukora vyose. Ruhindura kameremere, rutegeka"ivyo dukora ku gihababuko, ruyobora ivyo duhahamiye, kandi rugahingura ivyo twifuza. Uru rukundo, rwakiriwe mu mutima, rutanga akanovera ku buzima kandi rugatyorora aho tuba hose. Yohana yagerageje gufasha abizera gutahura imigisha idasanzwe boronka mu kwimenyereza kugira umutima w'urukundo. Ubu bushobozi bukiza, bwuzuye mu mutima, butegerezwa gutegeka iyindi migambi yose kandi bugakingira ababufise ibikorwa vy'agagituro vy'isi. Kandi ubwo urwo rukundo rwobogaboga kandi rugahinduka ubushobozi butegeka izindi mvo

zose mu buzima, ivyizigiro n'ukwizera Imana kwabo n'umubano wabo vyotimganye.

Bari gushobora rero kuza kuri We bizeye badakekeranya, bazi ko bazomuronkako ivyo bakeneye ku bwo ineza y'ubu buzima n'ubuzima budashira. Yanditse, ati «Iki ni co kimaze guhingura urukundo muri twebwe, kugira ngo tuze dushire ubwoba ku musi w'amateka: kuko uko ari, ari ko turi muri iyi si. Nta bwoba buba mu rukundo; ariko urukimdo ruhinguwe rusenda ubwoba.» «Kandi ubu ni bwo bushizi bw'ubwoba dufise kuri Yo, ni uko iyo dusavye ikintu cose gihwanye n'ivyo igomba, itwumva: Kandi ko tuzi yuko yumva ico dusavye cose, . . . bitumenyesha ko duhawe ivyo tuyisavye.»Kandi ni hagira umuntu akora icaha, dufise umwitsa kuri Data wa twese, ni Yesu Kristo mugororotsi, kandi uwo ni We mporigano y'ivyaha vyacu, mugabo si iyo ivyacu twenyene, ariko ni iyo ivyo abari mw'isi bose.» «Ni twatura ivyaha vyacu, ni Yo yo kwizigirwa, kandi igororoka, ivyo ni vyo bituma iduharira ivyaha vyacu, ikatwoza ukugabitanya kwose.» Ibisabwa n'Imana ngo turonke ikigongwe biroroshe kandi birumvikana. Umwami Imana ntadusaba kwibabaza ngo tugure ikigongwe. Nti dusabwa gukora ingendo ndende kandi ziruhije, canke ngo dukore ibihano vyo kwibabaza, ngo Imana yo mw'ijuru yemere imitima yacu canke ngo dutange impongano y'ivyaha vyacu. «Uwihana kandi akareka» icaha ciwe «azogiririrwa ikigongwe.» Imigani 28:13.

Mu manza zo mw'ijuru, Kristo ariko avugira ishengero-avugira abo yarihiye amaraso yiwe ngo abacungure. Ibinjana, imyaka, ntibishobora kugabanya ububasha bw'ikimazi c'impongano yiwe. N'ubugingo canke urupfu, uburebure bw'amajaruguru canke bw'amajepfo, ntibishobora kudutandukanya n'urukundo rw'Imana ruri muri Kristo Yesu; atari kubera tumwomye ko ahubwo kubera atugumije cane. Iyaba agakiza kacu gahagaze ku twigoro twacu, ntitworokotse; ariko gahagaze kuri wa wundi amasezerano yose ahagazeko. Dushobora kumwomako nabi nabi, ariko urukundo rwiwe ni urwo umuntu akunda murumunawe; igihe cose tugumye mu bumwe na We, nta n'umwe yotubatura mu kiganza ciwe. [290]

Ubwo imyaka yakurikiranye kandi igitigiri c'abizera kikiyongera, Yohana yongereje ubwizigirwa n'umwete mu gukorera bene Data. Ishengero ryari mu bihe vy'akaga gakomeye. Ku bwo kuvuga nabi ishengero n'ububeshi intumwa za Satani zagerageje kurwanya

inyigisho za Kristo, maze imitongano yo kugoreka inyigisho bigeramira ishengero. Bamwe mu biyita Abakristo bavuga ko urukundo rwiwe rwababohoye kwitondera ivyagezwe vy'Imana. Ku rundi ruhande, benshi bigisha ko ari ngombwa kwitondera imigenzo vy'Abayuda n'unihango y'urusengero; ko kwitondera ivyagezwe vyonyene, hatarimwo ukwizera amaraso ya Kristo, vyari bihagije ngo umuntu akizwe. Abandi bavuga ko Kristo yari umuntu mwiza, ariko bagahakana Ubumana bwiwe. Bamwe mu bigira abayoboke b'igikorwa c'Imana bari ababeshi, kandi mu bikorwa vyabo bagahakana Kristo n'ubutumwa bwiza bwiwe. Kubera bo ubwabo baba mu bigabitanyo, binjije inyigisho z'ibinyoma mw'ishengero. Gutyo benshi batwawe mu vyiyumviro vyo gukekeranya n'ubuzimire.

Yohana yagize agahinda abonye ubwo burozi bw'amakosa bunyengetera mw'ishengero. Yabonye akaga kageramiye ishengero, maze afata ingingo yo gutabara vuba vuba. Amakete ya Yohana ahumeka umutima w'urukundo. Bisa n'uko yandikishije ikaramu ikojeje mu rukundo. Ariko igihe yashikira abariko barahonyanga ivyagezwe vy'Imana, ariko biyambika izera, ntiyagize ikinya mu kubagabisha ku bwo ubuzimire bwabo buteye ubwoba.Yandikira umwe mu bo basangiye igikorwa c'ubutumwa bwiza, umugore ashingirwa intahe ku ngeso ziwe nziza, kandi amenyekana cane, yavuze ati: «Abigira abavugishwa n'Imana benshi baserutse baja mw'isi, batemera ko Yesu Kristo yaje afise umubiri. Uwumeze atyo, ni we ayobeza, kandi ni we Antikristo. Mwiyubare, ntimuhombe ivyo ibikorwa mwakoze, ariko ngo muhabwe ingero itagabanije. Umuntu wese ararata, ntagume mu vyo Kristo yigishije, ntafise Imana: uwuguma mu vyo yigishije, ni we afise Data wa twese n'Umwana. Ni hagira umuntu aza i wanyu, akaza azanye iyo nyigisho, ntimuze mumwakire mu nzu yanyu, kandi ntimuze mu-
[291] muhe ikaze: kuko uwuzomuha ikaze azoba afatanije na we mu bikorwa vyiwe bibi.»Abigira ngo bari muri Kristo kandi bahonyanga ivyagezwe vy'Imana, turemerewe kubafata nk'uko uwo mwigishwa mukundwa yabafashe. Muri iyi misi y'imperuka hari ibibi bisa n'ivyageramiye iterambere ry'ishengero rya mbere; kandi inyigisho z'intumwa Yohana ku bwo ivyo zitegerezwa gukurikizwa neza. «Mutegerezwa gukundana,» ako ni ko kamo kumvikana ahantu hose, na cane cane mu bigira aberanda. Ariko urukundo rw'ukuri ruratunganye ku buryo rudashobora gupfuka icaha kitatuwe. Naho

dusabwa gukunda abantu Kristo yapfiriye, ntidushobora gucudika n'ikibi. Ntidushobora kwifatanya n'ubugarariji hanyuma tuvyite ngo ni urukundo. Imana isaba abantu bayo bo muri iki gihe isi igezemwo guhagararira ukuri tudatinya nk'uko Yohana yakoze arwanya ibinyoma vyonona imitima.

Iyo ntumwa yigisha ko naho dusabwa kwerekana ubupfasoni Rukristo turemerewe kurwanya tutarya umunwa icaha n'abanyavyaha; ibi ntibiteye kubiri n'urukundo. Yandika ati, «Umuntu wese akora icaha akora ivy' ubugarariji: kandi icaha ni co mugararizo. Kandi murazi ko uwo yahishuwe kugira ngo akureho ivyaha, kandi ata caha kiri muri We. Umuntu wese aguma muri We ntakora ivyaha: uwukora ivyaha nyiyamubonye kandi ntiyamumenye.» Nk'icabona ca Kristo, Yohana ntiyinjira mu bihari, n'amajambo y'agasomborotso y'urudaca. Yavuga ivyo azi, ivyo yabonye kandi yumvise. Yari yabanye na Kristo mu bumwe, yumviriza inyigisho ziwe, abona ibitangaza vyiwe vy'agakura. Ni bake bashobora kubona ubwiza bwa kamere ya Kristo nk'uko Yohana yabibonye. Kuri we umwiza wari waheze; kuri we umuco nyakuri wariko urakayangana. Intahe yashingira ubuzima n'urupfu vya Kristo yari itomoye kandi igaragara. Yavuga ibivuye mu mutima ubogabogamwo urukundo rw'Umukiza; kandi nta bushobozi bwashobora guhangana n'amajaambo yiwe. Yemanze ati, «Icariho uhereye ubwa mbere na mbere, ico twumvise, ico twabonye n'amaso yacu, ico twitegereje, kandi intoke zacu zikagikorakora, ivyo kuri Jambo w'ubugingo; . . . ico twabonye tukacumva ni co tubabwira namwe, kugira ngo namwe mufatanye natwe: kandi natwe dufatanije na Data wa twese n'Umwana wiwe Yesu kristo.» Ese umwizera wese w'ukuri yoshobora kuvuga biciye mu buzima bwiwe bwite, «gutera igikumu ngo Imana ni iy'ukuri.» Yohana 3:33.

[292]

# Ikigabane ca 55: Guhindurwa N'ubuntu

Ubuzima bw'intumwa Yohana ni akarorero k'ukwezwa nyakuri. Mu myaka yabanye mu bumwe na Kristo, kenshi yaragabishijwe kandi ahanurwa n'Umukiza; kandi yaremeye izo mpanuro. Ubwo kamere y'Uwo yari Imana yigaragaza kuri we, Yohana yabonye utunenge twiwe, kandi yacishijwe bugufi n'iryo hishurirwa. Buri musi, yitegereza ubugwaneza n'ukwihangana vya Yesu bitandukanye n'umutima wiwe w'uburandamuke, kandi yumva ivyigwa vyiwe vyo kwicisha bugufi no kwihangana. Buri musi umutima wiwe wakwegwakwegerwa kuri Kristo, gushika aho yibagira ukwikunda kwiwe ku bwo urukundo rw'Umwigisha wiwe. Ubushobozi n'ubugwaneza, ubwiza n'ukwicisha bugufi, mkomezi n'ukwihangana, yabonye mu buzima bwa misi yose bw'Umwana w'Imana, vyatangaje umutima wiwe. Yahebeye ubushobozi bwa Kristo buhingura umimtu bukamukuramwo agatima kiwe ko kwihora, kameremere yiwe yo kurondera ivyubahiro, maze urukundo rw'Imana rukora muri we igikorwa co guhindura kamere. Ukwezwa kwakorewe mu buzima bwa Yohana kwatandukanye cane n'ivyabaye kuri Yuda, umwigishwa mugenziwe. Co kimwe na mugenziwe, Yuda yavuga ko ari umwigishwa wa Kristo, ariko yari afise gusa ishusho yo kwubaha Imana. Ntiyari igitandara imbere y'ubwiza bwa kamere ya Kristo; kandi kenshi, ubwo yumviriza amajambo y'Umukiza, yarumva ko anyuzwe, ariko ntiyashobora kwicisha bugufi canke ngo yature ivyaha vyiwe. Mu kwanka kwumvira ubushobozi bw'Imana yakengereye Umwigisha yavuga ko akunda. Yohana yarwanije amakosa yiwe yivuye inyuma; ariko Yuda we yarwanye n'umutimanama wiwe, yemera gutsindwa n'ikigeragezo, yihambirira ku ngeso mbi ziwe. Gushira mu ngiro ukuri Kristo yigisha kwari gutandukanye n'ivyifuzo vyiwe n'imigambi yiwe, kandi ntiyemera guheba ivyiyumviro vyiwe ngo aronke ubwenge buva mw'ijuru. Aho kugendera mu muco, yahisemwo kugendera mu mwiza. Ivyifuzo bibi, gukunda amahera, kwihora, gutara mu

nda ivyiyumviro vy'umwiza, yarabihaye icicaro mu mutima wiwe gushika aho Satani amutegeka ijana kw'ijana.

Yohana na Yuda bagereranya abantu biyita abigishwa ba Kristo. Abo bigishwa bompi bari bafise amahirwe angana yo kwiga no gukurikiza ico Citegererezo c'Imana. Bompi bagendana na Yesu kandi bari bafise amahirwe yo kwumviriza inyigisho ziwe. Umwe wese yari afise udusembwa muri kamere yiwe; kandi umwe wese yari afise uburenganzira bwo kwegera ubwo buntu bw'Imana buhindura kamere. Ariko igihe umwe yariko yicisha bugufi akigira kuri Yesu, uwundi we yagaragaza ko adashira mu ngiro ijambo, ahubwo ko ari uwuryumva gusa. Umwe buri musi yapfa kuri kamere yiwe yo kwikunda kandi akanesha icaha, akerezwa mu kuri; uwundi we, [293]
yarwana n'ubushobozi buhindura bw'ubuntu kandi akimika ivyifuzo vyo kwikunda, agirwa imbohe ya Satani.

Iryo hinduka rya kamere nk'iryo, ryabonetse mu buzima bwa Yohana, ryazanywe n' ugushikirana na Kristo. Umuntu ashobora kuba afise utunenge muri kamere yiwe, ariko iyo abaye umwigishwa wa kristo w'ukuri, ubushobozi bw'ubuntu bw'Imana buramuhindura kandi bukamweza. Mu kwitegereza nko mu kiyo ubwiza bw'Umwami, ahinduka ava mu bwiza aja mu bundi, gushika aho asa n'Uwo asenga. Yohana yari umwigisha w'iikugororoka, kandi mu makete yiwe ku mashengero yerekanye amategeko adahenda arongora inyifato y'Abakristo. Yanditse ati, «Kandi umuntu wese amuzigako ivyo, ariyeza, nk'uko uwo ari uwera.» «Uwuvuga ko ahora muri We, akwiye na we kugenda nk'uko uwo yagenda.» 1 Yohana 3:3; 2:6. Yigishije ko Umukristo ategerezwa kwera mu mutima no mu buzima. Ntashobora gushimishwa n'ukwizera kutagira ibikorwa. Nk'uko Imana ari iyera mu rwego rwayo, ni ko n'umuntu yaguye, biciye mu kwizera Kristo, ategerezwa kuba uwera mu rwego rwiwe. Intumwa Paulo yanditse iti, «Ico Imana igomba, ni ukwezwa kwanyu.» 1 Ab'i Tesalonike 4:3. Kwezwa kw'ishengero ni co Imana igendereye mu vyo ikorera abantu bayo vyose. Yabatoranije kuva kera, ngo babe abera. Yatanze Umwana wayo ngo apfe ku bwabo, ngo bezwe biciye mu kwumvira ukuri, bakamburwa amasigarira yose y'ukwikunda. Ibasaba gukora umuntu ku giti ciwe, akitanga burundu ku giti ciwe. Imana iheshwa icubahiro n'abavuga ko bamwizeye, igihe gusa basa na Yo, kandi bagategekwa na Mpwemu wayo. Gutyo rero, nk'abashingira intahe Umukiza, bashobora

kumenyesha abandi ico ubuntu bw'Imana bwababakoreye. Ukwezwa nyakuri kimyura mu gikorwa c'itegeko ry'urukundo. «Imana ni urukundo; kandi uwuguma mu rukundo aguma mu Mana, Imana ikaguma muri we.» 1 Yohana 4:16. Ubuzima bw'umuntu kristo aba mu mutima wiwe, buzogaragaza ukwubaha Imana mu ngiro. Kamere izokwezwa, ikuzwe, ishimwe, yambikwe ubwiza. Inyigisho nzima zizovangana n'ibikorwa vy'ukugororoka; amategeko y'ijuru azovangana n'ibikorwa bitagira agasembwa.

Abazohabwa imigisha yo kwezwa bategerezwa kubanza kwiga ico bisobanura kwitanga. Umusaraba wa Kristo ni yo nkingi kizigenza \yenenako «ubwiza buremereye bw'ibihe bidashira.» Kristo avuga ati, «Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire.» 2 Ab'i Korinto 4:17; Matayo 16:24. Ni ubumote bw'urukundo dukunda abantu bugaragaza urukundo dukunda Imana. Ni ukwihangana mu gufasha abandi kuzanira umutima akaruhuko. Ni mu kwiyorosha, kwitwararika,
[294] kuba umwizigirwa mu bikorwa ubutunzi bw'Isirayeli bwiyongera. Imana ishira hejuru kandi igakomeza umuntu yemera gukurikira inzira ya Kristo.

Kwezwa si igikorwa c' igihe, isaha, umusi, ahubwo ni igikorwa c'ubuzima bwose. Ntikuzanwa n'akantu karabije kanezereye umuntu, ariko kuzanwa no gupfa buri gihe ku caha, n'ukubana na ntaryo na kristo. Ibibi ntibishobora gukosorwa canke ngo bikurwe muri kamere n'utwigoro tudafashe, tw' imbonekarimwe. Ni mu kigoro k'igihe kirekire, ko guhozako, kwibabaza, n'intambara ikaze, tuzoshobora gutsinda. Nta musi n'umwe dushobora kumenya ingene intambara ikurikira izoba ikaze. Igihe cose Satani akiri ku ngoma, tuzosabwa guheba ukwikunda, kurwana na ntaryo n'icaha ngo tuneshe; igihe cose tuzoba tukiriho, ntituzohumeka, nta ntambwe tuzoshikako ngo tuvuge ngo Narahejeje. Ukwezwa kuzova mu kwumvira kw'igihe kirekire kwo kubaho kw'umuntu. Nta n'umwe mu ntumwa n'abavugishwa n'Imana yigeze avuga ko atagira icaha. Abantu babaye hafi y'Imana kurusha abandi, abantu botanga ubuzima bwabo aho gukora ikibi bakizi, abantu Imana yateye iteka mu kubaha umuco n'ubushobozi bwayo, batuye ububi bwa kameremere yabo y'icaha. Ntibizeye umubiri, ntibiyise abagororotsi, ariko bizeye rwose ubugororotsi bwa Kristo.

Uku ni ko bizoba ku bantu bose bitegereza Kristo. Uko twegera cane Kristo, maze tugatahura ubweranda bwa kamere yiwe, ni ko tuzobona neza ububi bw'icaha, kandi ntituzokwishira hejuru. Hazokwama hari ukurondera Imana, kwama tumeneka umutima twatura icaha kandi twicisha bugufi imbere yayo. Kuri buri ntambwe y'ubuzima bwacu nk'Abakristo ukwihana kwacu kuzorushiriza gushinga imizi. Tuzotahura ko Kristo wenyeye ari We aduhaggije kandi tuzokwatura nka ya ntumwa tuti: «Ndazi yuko muri jewe, (muri kameremere kanje,) ata ciza kimbamwo.» «Ariko jewe sinkirate ikindi, atari umusaraba w'Umwami wacu Yesu Kristo, watumye isi imbera ikibambwe, nanje isi nkayibera ikibambwe.» Abaroma 7:18; Ab'i Galatiya 6:14.

Reka abamarayika bajejwe kwandika bandike kahise intamba- ra zera n'ingorane z'abantu b'Imana; reka bandike amasengesho yabo n'amarira yabo; ariko ntimutume Imana ikozwa isoni n'amajambo avuye mu kanwa k'abantu ngo, «Nta caha mfise; ndi umweranda.» Iminwa yejejwe ntizokwigera isokorora amajambo yo kwigamba nk'ayo. Intumwa Paulo yari yaradugijwe mw'ijuru rya gatatu kandi yari yabonye kandi yumva ibintu bitemewe kuvugwa, ariko amajambo yiwe yiyoroheje yabaye aya: «Si ukugira ngo mpejeje kugihabwa, canke ngo mpejeje gutunganywa rwose: ariko ndabandanya.» Ab'i Fihpi 3:12. Reka abamarayika bo mw'ijuru bandike ivy' intsinzi za Paulo arwana intambara nziza y'ukwizera. Reka ijuru rinezerezwe n'intambwe ziwe z'ubuhizi atera agana mw'ijuru,
kandi agakurikira ingororano, aharura ibintu vyose nk'ivyondo. [295]
Abamarayika banezezwa no kuvuga intsinzi ziwe, ariko Paulo ntiyiratira ivyo yashitseko. Inyifato ya Paulo ni inyifato umwigishwa wa Kristo wese yari akwiye kugira ubwo akomeza urugendo rwiwe aja mw'ijuru akiranira urugori rudapfa.

Abumva bahengamiye ku kwiyita abagororotsi, ni birabire mu cirore c'ivyagezwe vy'Imana. Uko bazobona uburemere bw'ivyo ivyagezwe bisaba, kandi bagatahura igikorwa ca vyo co gusoma mu vyiyumviro no mu ntumbero zo mu mutima, ntibazokwirata ngo nta caha bagira. Yohana yavuze, atariko aritandukana n'abavukanyi, ati, «Tuvuze yuko ata caha dufise, tuba twizimiza, kandi ukuri ntikuba kuri muri twebwe.» «Tuvuze yuko ata caha twakoze, tuba tuyigize umubeshi,

kandi ijambo ryayo riba ritari muri twebwe.» «Ni twatura ivyaha vyacu, ni yo yo kwizigirwa kandi igororoka, ivyo ni vyo bituma iduharira ivyaha vyacu, ikatwoza ukugabitanya kwose.» 1 Yohana 1:8,10, 9.

Hari abavuga ko ari abagororotsi, bakemanga ko ari ab'Umwami buzuye, bakavuga ko bafise uburenganzira ku masezerano y'Imana, ariko banka kwubaha ivyagezwe vyayo. Abahonyanga ivyagezwe bifuza guhabwa ikintu cose casezeraniwe abana b'Imana; ariko ni abangushi, kuko Yohana atubwira ko gukunda Imana vy'ukuri bizogaragarira mu kwumvira ivyagezwe vy'Imana. Ntibihagije kwemera inyigisho z'ukuri, kwatura ko twizera Kristo, kwemera ko Kristo atari umwangushi, kandi ko idini rya Bibiliya atari imigani izimiza y'abantu. Yohana yanditse ati, «Uwuvuga ngo ndamuzi, ntiyitondere ivyagezwe vyiwe, ni umubeshi, ukuri ntikuri muri we. Ariko uwitondera ijambo ryiwe wese, ugukunda Imana kuba guhinguwe muri we vy'ukuri: iki ni co kitumenyesha ko turi muri We.»

«Uwitondera ivyagezwe vyiwe aba muri We, kandi na We aba muri we.» 1 Yohana 2:4,5; 3:24.

Yohana ntiyigishije ko agakiza kagurwa n'ukwumvira; ahubwo yigishije ko ukwumvira ari icamwa c'ukwizera n'urukundo. Yavuze ati, «Murazi yuko yahishuwe kugira ngo akureho ivyaha, kandi ata caha kiri muri We. Umuntu wese aguma muri We ntakora ivyaha: uwukora ivyaha wese ntiyamubonye kandi ntiyamumenye.» 1 Yohana 3 :5, 6. Nitwaguma muri Kristo, namba gukxmda Imana biba mu mutima, inyifato, ivyiyumviro, ibikorwa vyacu, bizohura n'ubugombe bw'Imana. Umutima wejejwe uhuza n'amategeko y'ivyagezwe vy'Imana. Hari benshi, naho bita ku rutare ngo bitondere ivyagezwe vy'Imana, bafise amahoro make canke akanyamuneza. Iki gihaze mu buzima bwabo kivana n'ukudakoresha ukwizera mu buzima bwabo. Bagenda nk'uko boba bariko bagendagenda kw'isi y'umunyu, ubugaragwa bwagadutse. Basaba bike, mu kibanza co gusaba vyinshi; kuko nta mbibe ziri ku masezerano y'Imana. Abantu nk'abo ntibatahura neza ukwezwa guca mu
[296] kwumvira ukuri. Umwami Imana yifuriza abahungu n'abakobwa bayo umunezero, amahoro, n'ukwumvira. Mu gukoresha ukwizera umwizera aronka iyo imihezagiro. Ku bwo kwizera, utunenge twa kamere turahera, umwanda wose ukozwa, ikosa ryose rigakosorwa, ikintu ciza cose kigakura.

Isengesho ni yo nzira yategekanijwe n'ijuru, yo gutsinda intambara yo kurwanya icaha n'ugukuza kamere Rukristo. Ivyo Imana ikora nk'igisubizo c'isengesho ry'ukwizera, bizokora mu mutima w'uwutakamba ivyo vyose asaba. Dushobora gusaba ikigongwe c'ivyaha, gusaba Mpwemu Yera, kameremere nk'iya Kristo, ubwenge n'inkomezi zo gukora igikorwa cayo, ingabire iyo ari yo yose yasezeranywe; kandi isezerano ni iri, «Muzohabwa.» Ku musozi ari kumwe n'Imana ni ho Mose yitegereje ishusho ya ya nyubako yari yiteze kuba icicaro c'ubwiza bwayo. Ni kuri uwo musozi turi kumwe n'Imana-mu mishikirano y'umwiherero-dushobora kwitegereza umugambi w'agatangaza Imana ifitiye abantu. Mu myaka yose, biciye mu mishikirano n'ijuru, Imana yaranguye umugambi wayo ifitiye abana bayo, mu guhishurira ubwenge bwabo intambwe ku yindi inyigisho zerekeye ubuntu bwayo. Uburyo bwayo bwo gushikiriza ukuri bugaragarira muri ya majambo, «Nk'uko umutwenzi atacowubuza kuza, ni ko na We azoza.» Hoseya 6:3. Uwishira mu kibanza aho Imana ishobora kumumurikira, atera intambwe nk'uko vyamye, ava mu muco muke w'umutwenzi agashikira umuco ukayangana wuzuye w'igicamusi.

Ukwezwa kw'ukuri gusobanura urukundo rwuzuye, ukugamburuka kwuzuye, uguhuza n'ubugombe bw'Imana kwuzuye. Dutegerezwa kuba inyegu z'Imana biciye mu kwumvira ukuri. Umutima wacu utegerezwa gutyororwa ibikorwa bipfuye kugira ngo dukorere Imana nzima. Ntituraba abatunganye; ariko dufise amahirwe yo kuvavanura n'ukwikunda n'icaha bitwizingirako, maze tugatera intambwe tugana ubugororotsi. Ubushobozi bwinshi, ibintu vyera kandi bihambaye dushobora gushikako, abantu bose bashobora kubishikira.

Igituma benshi muri iki gihe isi igezemwo badatera imbere cane mu buzima bw'Imana ni uko biyumvira ko ubugombe bw'Imana bugarukira ku vyo bifuza gukora. Igihe bakurikira ivyifuzo vyabo, birya akara ngo bariko bakora ubugombe bw'Imana. Abo ntibarwana n'ukwikunda. Hari abandi mu gihe gito baroranirwa mu ntambara yabo barwana n'ukwikunda kurondera ibiryohera umubiri n'ukwamikara. Ni abanyakuri kandi baritanga, ariko bakadebukirwa mu kigoro kabo, ko gupfa na ntaryo buri musi, k'ingorane z'urudaca. Ubunebwe bisa n'uko bubakwegakwega,

gupfa ku kwikunda bakabitera umugongo; maze bagahunikira kandi bagatsindwa n'ikigeragezo aho kugitsinda.

Inyigisho zanditswe mw'ijambo ry'Imana nta kibanza ziha ukwifatanya n'ikibi. Umwana w'Imana yerekanywe ngo yikwegereko [297] abantu bose. Ntiyaje kwingingira abantu guhwekerera mu gatiro, ahubwo yaje kwerekana inzira ipfunganye abantu bose bazokwegera amarembo y'igisagara c'Imana bategerezwa gucamwo. Abana biwe bategerezwa kugera ikirenge mu ciwe; bategerezwa kurwanya badahengeshanya ukwidibamira n'ukwikunda bakemera gutanga ikiguzi cose vyosaba. Ishimwe riruta ayandi abantu boshikanira Imana ni uguhinduka imiringoti yera Imana ishobora gukoreremwo. Ibihe birihuta cane. Ntitwime Imana ikimwegukira. Ntitumwime ikintu, naho kidashobora guhabwa umuntu atakibereye, kitabura kuzanira akaga uwutagihawe. Ishaka umutima utagabanije; ni muwuyihe; ni uwayo, ku bwo kuremwa no gucungurwa. Agusaba ubwenge bwawe; nubuyihe; ni ubwayo. Agusaba amahera yawe; nuyamuhe; ni ayayo. «Si mwe mwiganza, kuko mwaguzwe igiciro.» 1 Ab' i Korinto 6:19, 20. Imana isaba ko tuyishikanira umutima yiharije, witeguye, mu kwizera gukoreshwa n'urukundo, ngo uyikorere. Ishira imbere yacu urugero rwo hejuru, ni ukuvuga ubugororotsi. Idusaba kumwiyegurira muri iyi si nk'uko atwiyegurira imbere y'Imana.

«Ico Imana igomba» ku bwanyu, «ni ukwezwa kwanyu.» 1 Ab' i Tesalonike 4:3. Mbega ni ko na we uvyifuza? Ivyaha vyawe bishobora kuba bimeze nk'umusozi imbere yawe; ariko ni wicisha bugufi kandi ukatura ivyaha vyawe, wizeye ivyo Umukiza yabambwe kandi akazuka yagukoreye, azokubabarira kandi akwoze ibigabitanyo vyose. Imana igusaba ko witondera ivyagezwe vyayo ijana kw'ijana. Ivyagezwe vyayo bigaragaza rya jwi ryayo rivuga ngo, Ba mweranda rwose, ntuhengeshanye kuba mweranda rwose. Niwifuze ubuntu bwa Kristo bunengesereye. Reka umutima wawe urondera-ane igishika ubugororotsi, ca gikorwa ijambo ry'Imana rivuga ko ari amahoro, kikazana umutekano n'ugushira ubwoba ibihe vyose. Ubwo umutima wawe urondera Imana, uzokomeza kuronka ubutunzi bw'akataraboneka bw'ubuntu bwayo. Ubwo witegereza ubwo butunzi, uzoburonka kandi buzohishura ivyo ikimazi c'Umukiza cakumariye, uburinzi bw'ubugororotsi bwiwe, ubwenge bwiwe

bunengesereye, n'ubushobozi bwiwe bwo kukwerekana imbere ya Data «mutagira ikirabagu, kandi mutagira umugayo.» 2 Petero 3:14.

## Ikigabane ca 56: Patimo

Hari haheze imyaka irenga mirongo itanu ishengero rya Kristo ritunganijwe. Muri ico gihe ubutumwa bwiza bwari bwarwanijwe ubudahengeshanya. Abansi baryo ntibari bigeze bahumeka, kandi amaherezo bari bashoboye kwifashisha ubushobozi bwa Roma mu kurwanya Abakristo. Mu gahamo gakomeye kakurikiye, intumwa Yohana yakoze vyinshi ngo aremeshe kandi akomeze uk-
[298] wizera kw'Abakristo. Yashinga intahe abansi biwe badashobora kuvuguruza kandi yafashije bene Data kwihanganira amageragezwa yabashikiye bashize amanga kandi mu bwizigirwa. Igihe ukwizera kw'Abakristo kwasa n'uko guhungabanye, vyaba ngombwa ngo babonane n'uwo musuku wa Yesu ashaje, w'inararibonye, ngo abasubiriremwo mu bushobozi n'amajambo atomoye inkuru z'Umukiza yabambwe kandi akazuka. Yashikamye mu kwizera kwiwe, kandi mu kanwa kiwe hava na ntaryo bwa butumwa buteye igomwe: «Icariho uhereye ubwa mbere na mbere, ico twumvise, ico twabonye n'amaso yacu, ico twitegereje, intoke zacu zikagikorako, ivyo kuri rya Jambo ry'ubugingo; . . . ico twabonye tukacumva ni co tubabwira namwe.» 1 Yohana 1:1-3.

Yohana yari ashaje cane. Yarabonye irimbuka rya Yerusalemu na rwa rusengero rw'akaroruhore. Uwanyuma yasigaye mu bigishwa bari bacuditse cane n'Umukiza, ubutumwa bwiwe bwari bufise ububasha bwinshi mu kwerekana ko Yesu yari Mesiya, Umucunguzi w'isi. Nta n'umwe yashobora guhakana ukuri kwiwe, kandi biciye mu nyigisho ziwe abantu benshi barahevye ukutizera kwabo. Abategetsi b'Abayuda banka Yohana urunuka kubera yari umwizigirwa w'inshigwarimenetse ku gikorwa ca Kristo. Bavuga ngo utwigoro twabo two kurwanya Abakristo tuzoba impfagusa igihe cose igishingantahe ca Yohana kizosamiranira mu matwi y'abantu. Kugira ngo ibitangaza n'inyigisho vya Yesu vyibagiranwe, ijwi ry'ico cabona c'inshigwarimenetse ryategerezwa guhora. Ku bw'ivyo Yohana yategetswe kuja i Roma gucirwa urubanza ku bwo ukwizera kwiwe. Ashitseyo, inyigisho z'iyo ntumwa zaragoretswe

imbere y'abategetsi. Ivyabona vy'ibinyoma vyamureze ngo yigishije inyigisho zigoramye zigumura abantu. Mu kumurega, abansi biwe bizera ko baronka agatwe k'uwo mwigishwa.

Yohana yireguye mu majambo atomoye kandi atagira amahinyu, mu buryo bworoheje kandi bugaragara kandi amajambo yiwe yari afise ubushobozi bwo gukora ku mitima. Abamwumvise bataye amacumu ku bwenge bwiwe n'imvugo yiwe itangaje. Ariko uko igishingantahe ciwe cemeza abantu, ni ko n'urwanko rw'abansi biwe rwongerekana. Umwami Domisiyo yarashavuye cane. Ntiyashobora kurwanya ivyiyumviro vy'uwo muvugizi wa Kristo w'umwizigirwa, canke ngo ashikire ubushobozi bwaherekeza ukuri yavuga; ariko kandi afata ingingo yo kuzimanganya iryo jwi.Yohana yaterewe mu ngunguru y'amavuta ariko arabira; ariko Imana yazigamye ubuzima bw'umusuku wayo w'intahemuka, nk'uko yazigamye ba Baheburayo batatu mw'itanuri ry'umuriro. Ubwo bavuga aya majambo ngo Uku ni ko bazorimbuka abo bose bizera wa mwangushi Yesu Umunyanazareti, Yohana yavuze ati, Umwami wanje yihanganiye ivyo vyose Satani n'abamarayika biwe bashobora gukora kugira ngo bamukoze isoni kandi bamuhohotere. Yatanze ubugingo bwiwe [299]
ngo akize abari mw'isi. Ndatewe iteka no kwemererwa kubabara ku bwiwe. Ndi umunyantegenke, umunyavyaha. Kristo yari umugororotsi, umugwaneza, umuziranenge. Ntiyakoze icaha, kandi mukanwa kiwe nta buryarya bwabonetsemwo.

Aya majambo yakoze ibikomeye, kandi Yohana yavanywe muri iyo ngunguru na ba bandi nyene bari bayimutereyemwo. Agahamo kongeye kuremera iyo ntumwa. Ku bwo itegeko ry'umwami, yatawe ku kizinga Patimo, ahorwa «ijambo ry'Imana no gushingira intahe Yesu.» Ivyahishuriwe Yohana 1:9. Aho rero abansi biwe biyumvira atazongera kwumvikana, kandi ko amaherezo azokwicwa n'imiruho y'ibikorwa n'agahinda. Patimo, ikizinga c'ibibuye kigaragara kiri mu Kiyaga Agayi, Abaroma bari bagihisemwo ngo kibe ikibanza co gusenderamwo abicanyi; ariko kuri uwo musuku w'Imana ico kibanza c'umwiza cahindutse irembo ry'ijuru. Aho hantu, yahabaye ari kure y'imyitwarariko y'ubuzima busanzwe, n'ibikorwa yakoze mu myaka y'imbere, yibanira n'Imana na Kristo n'abamarayika bo mw'ijuru, kandi bamuha inyigisho izofasha ishengero mu bihe vyose bizoza. Ibizoba mu misi y'iherezo vyashizwe imbere yiwe; kandi ari aho nyene yanditse ivyo yeretswe bivuye ku Mana. Igihe ijwi ryiwe

ritazoba rigishingira intahe uwo yakunze kandi yakoreye, ubwo butumwa yaherewe muri ico kizinga bwategerezwa kuzobandanya buja imbere nk'itara ryaka,. bwamamaza umugambi w'Umwami Imana ku mahanga yose yo kw'isi.

Mu bitandara n'amabuye ya Patimo, Yohana yagiranye ubumwe n'Umuremyi wiwe. Yakubitije agatima mpembero ku buzima bwiwe bwahise, no ku mihezagiro yaronse, maze umutima wiwe wuzura amahoro. Yari yabayeho ubuzima Rukristo, kandi yashobora kuvuga yizeye ati, «Twebwe turazi yuko twavuye mu rupfu, twashitse mu bugingo.» 1 Yohana 3:14. Ivyo umwami yamwangaje ntiyashobora

kubivuga. Yashobora gusa kuraba inyuma akabona ibibuga vy'intambara, imivyimba, amazu yacitse amatongo, amarira y'abapfakazi n'impfuvyi, ingaruka y'ugukiranira ivyubahiro kwamuraza ishinga.

Ico gihe yari wenyene, Yohana yashobora kwiga neza kuruta ibindi bihe ivy'ibimenyamenya vy'ubushobozi bw'Imana nk'uko vyanditswe mu gitabo c'ibidukikije no mu mpapuro z'ijambo ry'Imana. Kuri we yari amahirwe kwiyumvira igikorwa c'irema no guhimbaza iyo Mana ikaba n'umuhinga karuhariwe. Mu misi yahise amaso yiwe yari yahimbawe n'imisozi yuzuye ibibira, ububande butotahaye, n'ibiyaya vyiyambitse ivyamwa; kandi mu bwiza bw'ivyaremwe yari yahimbawe no kubonamwo ubwenge n'ubuhinga bw'Umuremyi. Yari azungurutswe n'ibintu kuri bamwe vyari kuboneka nk'ibitagira ikimazi; ariko kuri Yohana vyari bitandukanye. N'ubwo yari akikujwe n'ubugaragwa n'irungu, amajuru y'ubururu yabogaboga hejuru yiwe yakayangana kandi afise ubwiza
[300] nk'ubw'ikirere cari hejuru ya ca gisagara gikundwa, Yerusalemu. Muri ubwo bugaragwa bw'ibitandara, mu kiyaga giteye amazinda, mu bwiza bw'ikirere, yize ivyigwa bihambaye. Vyose vyari vyiremetse ubutumwa bw'ubushobozi n'ubwiza vy'Imana.

Aho yaraba hose, iyo ntumwa yabona ibimenyetso vy'Umwuzure wari warimbuye isi kubera abantu bihaye guhonyanga ivyagezwe vyayo. Ibitandara vyacurangujwe biva kure mu kiyaga no mw'isi bitewe n'inkukura, vyamwibukije ibintu biteye ubwoba vya wa musi w'uburake bw'Imana. Mw'ijwi nk'iry'amazi menshi-ijwi risama nk'iry'inzamba-uwo muvugishwa n'Imana yumvise ijwi ry'Umuremyi. Ikiyaga, cashangashiwe kubera umuyaga utagira impuhwe, kuri we kigereranya uburake bw'Imana yababajwe

n'ibibi vy'abantu. Imikuba ikomeye, iteye ubwoba mu kwiruka kwayo, igafatirirwa n'imbibe zashizweho n'ikiganza kitaboneka, vyerekana ubushobozi butagira imbibe bw'Imana itegeka vyose. I ruhande y'ivyo, yatahuye intege nke n'ubusazi bw'abantu, nkaho ari inyo z'umukungugu, bishira hejuru biratira ubwenge n'inkomezi, bakikakisha imbere ya Segaba w'amahanga, nk'uko Imana yoba ihwanye na bo. Ivyo bitandara vyamwibukije Kristo, Igitandara kimuha inkomezi, yashobora kwihisha mu gitutu caco ata bwoba. Muri iyo ntumwa yangajwe ku kizinga Patimo c'amabuye, havuyemwo ukurondera Imana kutigeze kuboneka, amasengesho y'akataraboneka.

Inkuru ya Yohana yerekana uburyo butangaje Imana ishobora gukoresha abakozi bageze mu zabukuru. Igihe Yohana yangazwa ku kizinga ca Patimo, hari benshi bibaza ko yakukurutse, ikibingobingo cashaje kandi cavunitse, citeguye kugwa igihe ico ari co cose. Ariko vyahimbaye Imana ko ibandanya kumukoresha. Naho yari yangajwe kure y'aho yahoze akorera, ntiyahengeshanije gushingira intahe ukuri. No muri Patimo yaronse incuti n'abantu bakiriye Kristo. Ubutumwa bwiwe bwari ubwo umunezero, wo kwamamaza Umukiza yazutse, ari mw'ijuru, aho avugira abantu biwe gushika azogaruke kubajana iwe. Kandi amaze gusaza, ni ho Yohana yahawe n'Umwami Yesu ubutumwa buruta ubwo yari yaronse mu buzima bwiwe bwose bwa mbere.

Abantu batamakariye mu gikorwa c'Imana bategerezwa guhabwa icubahiro kidasanzwe. Abo bakozi batamakaye babaye abizigirwa hagati y'igihuhusi n'amageragezwa. Bashobora kuba bafise ubumuga, ariko baracafise ingabire zibafasha guhagarara mu kibanza cabo mu gikorwa c'Imana. Naho bashize, kandi badashobora kwiremeka imitwaro- iremereye abasore bokwiremeka kandi bategerezwa kwiremeka, impanuro bashobora gutanga ni iyo agaciro kanini. Bashobora kuba barakoze amakosa, ariko mu makosa yabo barize kwirinda amakosa n'akaga, none ku bw'ivyo ntibashobora gutanga impanuro z'ubwenge? Barapimwe kandi barageragezwa, [301]
kandi naho batakaje zimwe mu nkomezi zabo, Umwami ntabakumira. Abaha ubuntu n'ubwenge vy'umwihariko.

Abakoreye Umwami wabo igihe igikorwa cari kiruhije, bakihanganira ubukene kandi bakaguma ari abizigirwa igihe hari bake ba- shobora guhagararira ukuri, bategerezwa gushimwa kandi

bakubahwa. Umwami yifuza ko abakozi bakiri bato bunguka ubwenge, inkomezi, kandi bagakura kubwo kwigira kuri aba bantu b'abizigirwa. Abasore nibatahure ko kuba bafise abakozi nk'abo hagad yabo bagiriwe ubuntu budasanzwe. Nibabahe ikibanza c'iteka mu manama yabo. Ubwo abatanze ubuzima bwabo mu gikorwa ca Kristo begereza kurangiza igikorwa cabo kw'isi, bazokorwako na Mpwemu yera bibuke ivyababayeko mu gikorwa c'Imana. Ibitangaza akorera abantu biwe, urukundo rwiwe ntangere mu kubatabara mu mageragezwa, bitegerezwa kwama bibwirwa abashasha mu kwizera. Imana yifuza ko abakozi bashaje kandi b'inararibonye bahagarara mu kibanza cabo, bakora uruhara rwabo mu gukiza abagabo n'abagore batwawe n'ubushobozi bw'imikuba y'ikibi, yifuza ko bagumya ibirwanisho gushika aho izo-bategeka kubishira hasi.

Mu vyashikiye intumwa Yohana ari mu gahamo, hari icigwa gikomeye cane, kandi kiremesha Umukristo. Imana ntibuza imigambi y'abanyakibi, ariko ikoresha iyo migambi yabo ku neza y'abo, mu mageragezwa no mu ngorane bagumana ukwizera n'ubwizigirwa. Kenshi abakozi b'ubutumwa bwiza bakorera mu bihuhusi vy'agahamo, abansi, n'akarenganyo gakomeye. Mu bihe nk'ivyo nibibuke ko ivyo bazokwungukira mw'itanuri ry'ibigeragezo n'imibabaro bizobagirira akamaro kanini. Muri ubwo buryo Imana izana abana bayo hafi yayo, ngo ibereke intege nke zabo n'inkomezi zayo. Ibigisha kuyinamba-ko. Gutyo rero ibategura guhwana n'ingorane zikomeye, guhagarara mu bibanza bikenewemwo abizigirwa, no gushira mu ngiro imigambi ihambaye yatumye bahabwa ubwo bushobozi.

Mu myaka yose ababaye ivyabona Imana yatoranije bamye batukwa kandi bahamwa bazira ukuri. Yosefu yarementanirijwe kandi ahamwa kubera yagumye ari intungane n'umwizigirwa. Dawidi, intumwa yatoranijwe n'Imana, yahizwe bunyamaswa n'abansi biwe. Daniyeli, yatawe mu rwobo rw'intare kubera yanse guhemukira ijuru. Yobu yanyazwe ubutunzi bwiwe bwose, kandi asinzikazwa mu mubiri gushika n'aho azinukwa n'umuryango n'abagenzi; ariko yagumye ari umwizigirwa. Yeremiya ntiyashobora guhora ngo ntavuge amajambo Imana yari yamuhaye kuvuga; kandi intahe yiwe yarakaje umwami n'abaganwa ku buryo yatawe mu cobo gishisha. Stefano yicishijwe amabuye kubera yamamaje

Kristo, kandi Kristo yabambwe. Paulo yatawe mw'ibohero, arakubitwa,
aterwa amabuye, kandi amaherezo aricwa kubera yabaye
intumwa yizigirwa ku banyamahanga. Yohana na we yangajwe ku [302]
kizinga ca Patimo «bamuhora ijambo ry'Imana no gushingira intahe
Yesu Kristo.»

Utu ni uturorero tw'abantu bashikamye mu gushingira intahe amasezerano adahinduka y'Imana-y'ubuntu bwayo bwamana n'abantu kandi bukabashigikira. Twerekana ubushobozi bw'ukwizera, bwo guhangana n'ubushobozi bw'isi. Ni igikorwa c'ukwizera kuruhukira mu Mana mu gihe kirengeje mu kuba kibi, kwumva, naho woba ugeragezwa kandi usagirijwe n'igihuhusi, ko Data ari: We ayobora ubuzima, bwacu. Amaso y'ukwizera yonyene ni yo ashobora kuraba kure y'ibintu vy'iki gihe agatahura agaciro k'ubutunzi dudashira. Yesu ntiyereka abamukurikira ivyizigiro vyo gushikira icubahiro n'ubutunzi vy'isi, vy'ukubaho ubuzima butagira amagerage-zwa. Ahubwo abasaba kumukurikira mu nzira yo kwiyanka n'ibitutsi. Uwaje gucungura abari mw'isi yarwanijwe n'inkomezi zikoranye zose z'ikibi. Mu bumwe bw'imburakigongwe, abantu babi n'abamarayika babi bahagurukiye kurwanya Umwami w'Amahoro. Ijambo ryose n'ikintu cose yakora vyerekana impuhwe z'Imana, kandi ubudasa n'isi bwiwe bwatumye yankwa urunuka. Uku ni ko bizoba ku bantu bose bazobaho bubaha Imana muri Kristo. Agahamo n'ibitutsi birindiriye abo bose buzuye Mpwemu wa Kristo. Ubwoko bw'agahamo buhinduka uko ibihe bihinduka, ariko ingingo-agatima kihishije mu gahamo-ni ka kandi kishe abatoranijwe b'Imana uhereye ibihe vya Abeli.

Mu myaka yose Satani yamye ahama abantu b'Imana. Yarabahohoteye kandi arabica, ariko mu rupfu rwabo baronse intsinzi. Bashingiye intahe y'Uwukomeye kuruta Satani. Abantu babi bashobora guhohotera umubiri, ariko ntibashobora gukora ku buzima buhishijwe hamwe na Kristo mu Mana. Bashobora kwugaranira abagabo n'abagore mu mpome z'ibohero, ariko ntibashobora kuboha umutima.Mu mageragezwa no mu gahamo,ubwiza-kamere y'Imana ihishurirwa mu bo yatoranije. Abizera Kristo, bankwa bagahamwa n'isi, bigishwa kandi bagatozwa indero mw'ishure rya Kristo. Mw'isi bagendera mu nzira zaga; batyororerwa mw'itanure ry'intuntu. Bakurikira Kristo mu ngorane nyinshi; bemera kwiyanka kandi bagaca mu bibaca intege; ariko ni muri ubwo buryo batahura

ububi bw'icaha, kandi bakacanka urunuka. Ku bwo gusangira imibabaro na Kristo, bashobora kubona inyuma y'umwiza bakitegereza ubwiza, bavuga bati, «Niyumvira yuko imibabaro y'iki gihe idakwiye kugereranywa n'ubwiza tuzohishurirwa.» Abaroma 8:18.

## Ikigabane ca 57: Ihishurirwa

Mu misi y'intumwa Abakristo bari buzuye umwete n'igishika cinshi. Gutyo bakoreye Umwami wabo mu mwanya muto cane, n'ubwo hari ingorane nyinshi, ubutumwa bwiza bwumvikanye mu [303]
turere twose tw'isi turimwo abantu. Umwete abigishwa ba Yesu berekanye muri ico gihe wanditswe mw'ijambo ry'Imana ngo utere intege abizera bo mu bihe vyose.

Kw'ishengero ry'i Efeso, iryo Umwami Yesu afata nk'ikimenyetso c'ishengero rya Kristo ryose mu bihe vy'intumwa, Icabona cizigirwa kandi c'ukuri yavuze ati: «Ndazi ibikorwa vyawe n'ubutame bwawe

n'ukwihangana, kandi yuko udashobora kwirengagiza ababi: ariko wagenzuye abiyita intumwa kandi atari zo, usanga n'abanyabinyoma: kandi ugira ukwihangana, wirengagije ivyo ugirirwa kw'izina ryanje, ntiwacobogora.» Ivyahishuwe 2:2, 3.

Mu ntango ubuzima bw'ishengero ry'i Efeso ryarangwa n'ubwitonzi n'umwete nk'uw'umwana. Abizera bagerageza bashimitse kwumvira ijambo ryose ry'Imana, kandi ubuzima bwabo bwagaragaza urukundo rwa Kristo rukomeye kandi rw'ukuri. Bahimbarwa no gukora ubugombe bw'Imana kubera Umukiza yibera mu mitima yabo. Kubera bari buzuye urukundo bakunda Umucunguzi, intumbero yabo nyamukuru yari iyo kumuzanira imitima. Ntibiyumvira kwikumirirako ubutunzi buhebuje bw'ubuntu bwa Kristo. Batahuye akamaro k'umuhamagaro wabo; kandi baremerewe n'ubu butumwa, «Mw'isi amahoro abe mu bo anezererwa,» barurumba icifuzo co gutwara inkuru nziza z'agakiza mu bibanza vy'isi vyinyegeje. Kandi amahanga yamenye ko bagendanye na Yesu. Abanyavyaha, bihanye, bababariwe, bogejwe, kandi bejejwe, banywanishijwe n'Imana biciye mu Mwana wayo.

Abanywanyi b'ishengero bari basangiye umutima n'inama. Urukundo bakunda Kristo ni wo wari umunyororo w'izahabu wababumbira hamwe. Babandanya bihatira kumenya Umwami Yesu kuruta uko bamuzi, kandi mu buzima bwabo hagaragara umunezero n'amahororo ya Kristo. Baragendera impfuvyi n'abapfakazi

mu kababaro kabo, kandi baririnda kwanduzwa n'isi, batahura yuko gukora ibinyuranye n'ivyo kwoba ukuvuguruza ivyo bizeye n'ukwihakana Umucunguzi wabo.

Mu gisagara cose igikorwa caratera imbere.Abantu barahindukirira Imana, nabo bakumva ko bategerezwa kuvuga ivyo ubutunzi buhebuje baronse. Ntibashobora guhumeka gushika umuco wamurikiye imitima yabo ukayanganire ku bandi. Amasinzi y'abatizera yaratahuye impamvu z'ivyizigiro vy'Umukristo.Imihamagaro y'ubugwaneza yarashikirizwa abazmuye, abagizwe ibicibwa, n'abo, naho bavuga ko bazi ukuri, bakunda ibibaryohera kuruta uko bakunda Imana. Ariko inyuma y'igihe gito umwete w'abizera waragabanutse, maze urukundo bakunda Imana n'abandi ruragabanuka. Ubukonje bwaranyengetereye buhabwa indaro
[304] mw'ishengero. Bamwe baribagiye uburyo butangaje bakiriyemwo ukuri. Abari akarorero k'abatwara muco barakurikiranye mu gusezera isi. Bamwe mu bakozi bakiri bato, bari gusangira imitwaro n'abo bakurambere, gutyo bakitegurira kuba abarongozi b'ubwenge, bararuhijwe n'ukwama kuri ukwo kuri. Mu cifuzo cabo co kuronka ikintu gisha kandi kiryoheye ugutwi, bagerageje kwinjiza inyigisho nsha, ziryohera benshi, ariko zidahuye n'ingingo ngenderwako z'ubutumwa bwiza. Mu kwiyemera kwabo no mu buhumyi bwabo bwo mu vy unpwemu, ntibashoboye gutahura ko izo nyigisho zizotuma benshi bahakana kahise baciyemwo, kandi bagaherukira mu kuzazanirwa n'ukutizera.

Ubwo izo nyigisho z'ibinyoma zashirwa imbere, havyutse ukutabona kumwe ibintu, kandi amaso ya benshi ntiyasubira kwitegereza Kristo nk'Uwatanguje ukwizera kwabo kandi Uwuzogushitsa kw'iherezo. Ibihari ku ngingo zihambaye z'inyigisho, n'ukwiroderera imigani iryoshe y'ibinyoma yubatswe n'abantu, itwara umwanya wokoreshejwe mu kuvuga ubutumwa. Aya masmzi y'abantu yari kwemera kandi agahindukirira Imana ku bwo ubutumwa bwiza ntibagabishijwe. Ukwubaha Imana kwazimanganye vuba vuba, kandi Satani yasa n'uko yanesheje abavuga ko ari Abigishwa ba Kristo. Ni muri ico gihe kigoye c'ubuzima bw'ishengero Yohana yaciriwe urwo kwangazwa. Ijwi ryiwe ntigigeze riba nkenerwa kw'ishengero nko muri bino bihe. Nka bose mu bo bari basangiye igikorwa bari bamaze kwicwa bazira ukwizera kwabo.

Amasigarira y'abizera bariko baraca mu gahamo gakomeye. Ku vyo amaso abona, hari hasigaye gato gusa ngo abansi b'ishengero rya Kristo batahukane intsinzi. Ariko ukuboko kw'Uhoraho kwariko kurakora mu mwiza kutaboneka. Mu burongozi bw'Imana, Yohana yashizwe ahantu Kristo ashobora kumwihishurira mu buryo bwuzuye no kumuhishurira ukuri kw'Imana kuzomurikira amashengero yose.

Mu kwangaza Yohana, abansi b'ukuri bari bizeye ko bazokwugara burundu ijwi ry'icabona c'Imana c'intungane; ariko kuri Patimo uwo mwigishwa yaronse ubutumwa, igikorwa cabwo kizobandanya gukomeza ishengero gushika ku muhero w'isi. Naho batakuweko inkurikizi y'igikorwa cabo kibi, abangaje Yohana babaye ibikoresho mu maboko y'Imana vyo gushitsa umugambi w'Ijuru; kandi utwigoro nyene two kuzimanganya umuco twashize ukuri mu kibanza butoreramwo akoyoko. Hari kw'Isabato uwo musi Umwami w'ubwiza abonekera iyo ntumwa yangajwe. Yohana yubahirije Isabato ari i Patimo nk'uko yayubahiriza igihe yasigurira abantu ijambo ry'Imana mu bisagara vy'i Yudeya. Yiharura nk'ayiwe, amasezerano y'agaciro yatanzwe .ajanye n'uwo musi. Yohana yandika ati, «Ku musi w'Imana nari muri Mpwemu, numva inyuma yanje ijwi rirenga nk'iry'inzamba, rivuga riti, Jewe ndi Alufa na Omega, uwa mbere n'uwanyuma. . . . Nuko mpindukira kuraba [305]
ijwi rivuganye nanje. Mpindukiye mbona ibiterekwako amatara ndwi; kandi hagati y'ivyo biterekwako mbona uwusa n'Umwana w'umuntu.» Ivyahishuwe 1:10-13.

Yagiriwe amahirwe adasanzwe uwo mwigishwa mukundwa. Yari yarabonye Umwigisha wiwe i Getsemane, mu maso hiwe huzuye amaraso y'akababaro, «mu maso hiwe. . . hononekaye ntihase n'ah'umuntu, n'ishusho yiwe yononekaye ntise n'iy'abana b'abantu.» Yesaya 52:14. Yari yaramubonye mu minwe y'abasoda b'Abaroma, yambaye ikanzu y'inyambarabami n'urugori rw'amahwa. Yari yaramubonye yenena ku musaraba w'i Kaluvari, yabaye akamenyo n'agashinyaguro. Ubu Yohana yemerewe kandi kwitegereza Umwami wiwe. Ariko ntiworaba ingene yahindutse! Ntakiri umuntu w'imibabaro, akengerwa kandi agacokorwa n'abantu. Yambaye impuzu y'ugukayangana kwo mw'ijuru. «Umutwe wiwe n'umushatsi wiwe» bisa «n'ubwoya bw'intama y'umwero, canke nka shelegi; kandi inyonga ziwe . . . nk'imbeya

z'umuriro; kandi ibirenge vyiwe vyasa n'umuringa w'umwakaka, utukujwe n'umuriro.» Ivyahishuwe 1:14, 15, 17. Ijwi ryiwe ryari rimeze nk'iry'amazi menshi asuma. Mu maso hiwe hakayangana nk'izuba. Mu biganza vyiwe hari inyenyeri ndwi, kandi mu kanwa kiwe havamwo inkota ikarishe y'ubugi bubiri, igereranya ubushobozi bw'ijambo ryiwe. Patimo igizwe nziza n'ubwiza bw'Umwami Yesu ahari. Yohana yandika ati, «Ndamubonye, nikubita imbere y'inyundo ziwe nk'uwupfuye. Maze anshirako ukuboko kw'i buryo, ati Ntutinye.» Umurongo wa 17.

Yohana yakomejwe no kubana n'Umwami wiwe ari mu bwiza. Hanyuma imbere y'ibitangaza yeretswe hugurutse ivyiza vy'ijuru. Yemerewe kubona intebe y'Imana kandi, aravye hirya y'intambara zo mw'isi, abona isinzi ry'abakijijwe bambaye amakanzu yera. Yumvise indirimbo z'abamarayika bo mw'ijuru n'indirimbo z'intsinzi z'abatsinze ku bwo amaraso y'Umwagazi w'intama n'ijambo ryo gushinga intahe kwabo. Mu vyo yeretswe hahishuwe ido n'ido y'ibihambaye vyabaye mu buzima bw'abantu b'Imana, n'ibizoshikira ishengero gushika ku muhero w'isi. Mu bimenyesto n'ingereranyo Yohana yeretswe ibintu bihambaye, yategerezwa kwandika, ngo abantu b'Imana bazobaho mu gihe ciwe no mu bihe bizoza bazotegerezwa gutahura vyerekeye akaga n'intambara biri imbere yabo. Iri hishurirwa ryatanzwe ngo rirongore kandi riremeshe ishengero mu bihe vyose Abakristo bazoba bariho. Ariko abigisha b'amadini bavuze ko ari igitabo kimatanije kandi ko amabanga yaco adashobora gusobanurwa. Ku bw'ivyo benshi bateye umugongo Ivyanditswe Vyera, banka gufata umwanya no kwiga ibihishijwe muii vyo. Ariko Imana ntiyifuza ko abantu bayo gufata gutyo ico gitabo. Ni «uguhishura kwa Yesu Kristo, ukwo
[306] yahawe n'Imana ngo yereke abagurano biwe ibigira bibeho vuba.» «Hahirwa uwusoma,» niko Uhoraho avuga, «hahirwa n'abumva amajambo y'uku kuvugishwa n'Imana, bakitondera ivyanditswe muri yo: kuko igihe kiri hafi.» Imirongo 1, 3. «Uwumva wese amajambo yavugishijwe yo muri iki gitabo ndabishingira intahe kuri we, nti Nihagira umuntu azokwungurira kuri yo, Imana izomwunguka'ku vyago vyanditswe muri iki gitabo: kandi ni hagira umuntu akura ku majambo y'igitabo c'ibi vyavugishijwe na yo, Imana izomukura ku mugabane wa ca giti c'ubugingo no kuri wa murwa wera, vyan-

ditswe muri iki gitabo. Uwushingira intahe ivyo, aravuga ati Ego me, ndaza vuba.» Ivyahishuwe 22:18-20.

Mu Vyahishuwe handitswemwo ibintu vy'agaciro vy'Imana. Izina ubwaryo ryahawe impapuro zavyo zahumekewe, «Ihishura,» rivuguruza amajambo yemanga ko iki gitabo cairiatanijwe. Ihishura ni ikintu cashizwe ahagaragara. Umwami ubwiwe yahishuriye umusuku wayo amabanga ari muri iki gitabo, kandi yifuza ko ayo mabanga azokwugururirwa bose ngo bayige. Ukuri kwayo kubarirwa abariho mu misi ya nyuma y'ubuzima bw'iyi si, kandi akabarirwa n'abariho mu misi ya Yohana. Bimwe mu bivugwa muri aya majambo yavugishijwe biri muri kahise, ibindi biriko biraba ubu; bimwe vyerekana intambara ihambaye ya nyuma iri hagati y'ububasha bw'umwiza n'Umwami w'ijuru, ibindi na vyo bihishura intsinzi n'akanyamuneza vy'abacunguwe mw'isi yahinduwe nsha. Ntihagire abibaza ko, kubera badashobora gusobanura insiguro ya buri ngereranyo yo mu Vyahishuwe, ataco bimaze kurondera muri iki gitabo mu kigoro ko kumenya ubusobanuro bw'ukuri kuri muri co. Uwasobanuriye ayo mabanga Yohana azoha umushakashatsi aroidera ukuri, imponjo y'ivyo mw'ijuru. Abafise imitima yuguruye ngo yakire ukuri bazoshobozwa gutahura inyigisho zakwo, kandi bazohabwa imigisha yasezeraniwe abumva «amajambo y'uku kuvugishwa n'Imana kandi bakitondera ivyanditswe muri yo.»

Mu Vyahishuwe ibitabo vyose vya Bibihya bihuriramwo kandi bikarangiriramwo. Aha harimwo inyunganizi ku gitabo ca Daniyeli. Kimwe ni ivyavugishijwe; ikindi ni ihishura. Igitabo camatanijwe si Ivyahishuwe, ahubwo hamatanijwe igice ca nyuma c'amajambo yavugishijwe ya Daniyeh yerekeye imisi y'imperuka. Umumarayika yategetse, ati «Nuko rero wewe Daniyeli, gumiza ayo majambo muri ntibate, umatanishe ishashara igitabo cavyo udomeko ikimenyetso, gushitsa igihe c'iherezo.» Daniyeli 12:4.

Ni Kristo yategetse iyo ntumwa kwandika ivyo yeretswe biri imbere yiwe. «Ico ubona ucandike mu gitabo,» Niko Kristo yategetse, «kandi ukirungikire amashengero ndwi ari muri Asiya; muri Efeso, n'i Simuruna, n'i Perugamo, n'i Tuwatira, n'i Sarudi, n'i Filadelufiya, n'i Lawodikiya.» «Kandi ndi muzima; nari narapfuye, kandi raba ndi muzima ibihe bitazoshira. . . . Nuko wandike ivyo ubonye [307]
n'ibiriho n'ibizoza hanyuma y'ivyo; ibanga ry'inyenyeri ndwi izo umbonanye mu kuboko kwanje kw'i buryo, n'ivyo ibiterekwako am-

atara ndwi ni zo bamarayika b'ayo mashengero ndwi, ibiterekwako amatara ndwi na vyo ni vyo mashengero ndwi.» Ivyahishuwe' 1:11, 18-20. Amazina y'ayo mashengero ndwi agereranya ishengero mu bihe bitandukanye vy'ikiringo c'Ubukristo. Igitigiri 7 cerekana ikintu cuzuye, kandi ni ingereranyo y'uko ubutumwa bushika ku gihe c'iherezo, naho ingereranyo zakoreshejwe zihishura uko ishengero rizoba rimeze mu bihe bitandukanye vy'ubuzima bw'isi. Kristo avugwa ko ariko aragendagenda hagati y'ibiterekwako amatara vy'izahabu. Ibi bigereranya imigenderanire yiwe n'ayo mashengero. Yama avugana n'abantu biwe ubudahengeshanya. Arazi uko bameze atihenda. Aritegereza urutonde rwabo, ukwubaha Imana kwabo, n'ukwitanga kwabo. Naho ari umuherezi mukuru n'umwitsa mw'ihema ryo mw'ijuru, agereranywa n'uwugendagenda aduga yongera amanuka hagati y'amashengero yiwe kw'isi. Yama na ntaryo ari maso kandi agavye, yihweza ngo arabe ko itara ry'abarinzi biwe rigabanya umuco canke rizima. Iyaba ibiterekwako amatara birindwa n'umuntu buntu, umuco wogabanuka kandi urubeya rukazima; ariko ni we murinzi nyakuri mu nzu y'Imana, umugenduzi nyakuri w'abarinzi b'urusengero. Uburinzi bwiwe budahengeshanya n'ubuntu bwiwe budushigikira ni isoko y'ubuzima n'umuco.

Kristo agereranywa n'uwufashe inyenyeri ndwi mu kuboko kw'i buryo kwiwe. Ibi bitwizeza ko ata shengero na rimwe ryashizwe mu maboko atarekura yiwe rikwiye gutinya ko ryotaha zirayoye, kuko ata nyenyeri iri mu bwigobeko bw'Iyishobora vyose ishobora kunyagwa mu kuboko kwa Kristo. «Uwufashe inyenyeri ndwi mu kuboko kwiwe kw'i buryo aravuga ibi.» Ivyahishuwe 2:1. Aya majambo abwirwa abigisha mu mashengero-abo Imana yashinze amabanga ahambaye. Ibikorwa vyiza bitegerezwa kuba vyinshi mw'ishngero bifatanirijwe hamwe n'abavugabutumwa b'Imana, basabwa guhishura urukundo rwa Kristo. Inyenyeri z'ijuru ziri musi y'ubutegetsi bwayo. Azuzuza umuco. Araziyobora kandi akazerekeza iyo zija. Atagenjeje atyo, zohinduka inyenyeri zaguye. Uko ni ko biri no ku bavugabutumwa bayo. Ni ibikoresho gusa mu maboko yayo, kandi iciza cose bakora gikorwa mu bushobozi bwayo. Biciye muri bo umuco wayo utegerezwa kuja imbere ukayangana. Umukiza ni We ategerezwa kubabera vyose. Nibamuhanga amaso nk'uko yahanga amaso Se, bazoshobozwa gukora igikorwa ciwe.

Uko bishimikiza Imana, azobaha ugukayangana kwiwe ngo bamurikire amahanga yose.

Kare kare mu buzima bw'ishengcro ibanga ry'umugararizo nkuko intumwa Paulo yari yaritanzeko imburi ryatanguye igikorwa caryo c'ubugizi bwa nabi; kandi ubwo ba bigisha b'ibinyoma Petero [308] yari yagabishije abizera ngo birinde, binjiza inyigisho zigoramye zabo, benshi batwawe n'izo nyigisho baragwa. Bamwe baracobogoye ku bwo imibabaro kandi bahakwa guta ukwizera. Mu gihe Yohana yahabwa iri hishurirwa, benshi bari bataye urukundo rwa mbere bakunda ukuri kw'ubutumwa bwiza. Ariko ku bwo imbabazi z'Imana ntibavuye mw'ishengero ngo bakomeze kuba muri iyo nyifato y'uguheba ukwizera. Mu butumwa bwuzuye urukundo rutagira akagero yabahishuriye urukundo ibafitiye n'icifuzo cayo ko bomukorera ibihe bidashira. «Niwibuke,» niko yabinginze, «aho wavuye ukagwa; wihane, ukore ibikorwa nk'ivya mbere.» Umurongo 5.

Ishengero ryari ryononekaye kandi rikeneye gukankamirwa no guhanwa, kandi Yohana yahumekewe kwandika ubutumwa bwo kugabisha no gukankamira no kwinginga kuri abo, ku bwo kwibagira amategeko ngenderwako y'ubutumwa bwiza, bohavuye batakaza ivyizigiro vy'agakiza. Ariko imisi yose amajambo y'akanywafinywafi Imana ibona ko ari nkenerwa kurungika avugwa mu rukundo n'isezerano ry'amahoro ku mwizera wese yihanye. Umwami Imana avuga ati, «Ehe mpagaze ku rugi, ndaramukije. Umuntu ni yumva ijwi ryanje, akugurura urugi, ndinjira i we, dusangire.» Ivyahishuwe 3:20.

Kandi ku bari mu ngorane bategerezwa kuguma bizeye Imana, uwo muvugishwa n'Imana yahawe amajambo y'ishimwe n'isezerano: «Ndazi ibikorwa vyawe: ehe nshize imbere yawe urugi rwuguruye, nta wushobora kurwugara: ufise ubushobozi buke, kandi witondeye ijambo ryanje, ntiwihakanye izina ryanje.» «Kuko witondeye ijambo ryo kwihangana kwanje, nanje nzokiuinda igihe co kugerageza, kigira kize kugerageza ababa mw'isi.» Abizera bahanuwe ngo: «Gira ube maso, ukomeze ibisigaye bigira bipfe.» «Ngira nze vuba: wumire ku co ufise, ntihagire uwugutwara igitsibo cawe.» Imirongo 8,10, 2,11.

Wa wundi yivuga ubwiwe ko ari «mwene So, musangiye amarushwa» Ivyahishuwe 1:9, ni we Kristo yakoresheje mu guhishurira ishengero ibintu bategerezwa kubabazwa ku bwiwe.

Akubitije amaso mu binjana vyinshi vy'umwiza n'ukwizera ibintazi, uwo mutama yangajwe yabonye amasinzi y'abantu apfa azira ukwizera ku bwo urukundo bakunda ukuri. Ariko kandi yabonye ko Uwashigikiye ivyabona vyiwe vya mbere atazokwibagira abigishwa biwe b'abizigirwa mu binjana vy'agahamo bategerezwa gucamwo imbere y'umuhero w'isi. «Umwami Yesu yavuze ati, «Ntutinye ivyo ugira ubabazwe. Ehe uwo Murwanizi agira ashire bamwe muri mwebwe mw'ibohero kugira ngo mugeragezwe, kandi muzogira amarushwa: . . . Wame uyoboka gushitsa kugupfa, nanje nzoguha igitsibo c'ubugingo.» Ivyahishuwe 2:10.

[309] Kandi ku bayoboke bariko bararwana n'ikibi, Yohana yumvise aya masezerano: «Uwunesha, nzomuha kurya ku giti c'ubugingo kiri muri Paradiso y'Imana.» «Uwunesha, azokwambikwa atyo impuzu zera, kandi sinzosibanganya izina ryiwe mu gitabo c'ubugingo na mba, kandi nzokwatura izina ryiwe imbere ya Data, n'imbere y'abamarayika biwe.» «Uwunesha, nzomuha kwicarana nanje ku ntebe yanje y'ubwami, nk'uko nanje nanesheje nkicarana na Data ku ntebe yiwe.» Imirongo 7; 3:5, 21.

Yohana yabonye imbabazi, ubugwaneza, n'urukundo rw'Imana bivanze n'Ubugororotsi, ubutungane n'ubushobozi. Yabonye abanyavyaha baronka muri We Data, wa wundi ivyaha vyabo vyari vyabateye kumutinya. Kandi aravye hirya inyuma y'iyo ntambara ihambaye, yabonye kuri Siyoni, «abatabarutse banesheje . . . bahagaze kuri ico kiyaga c'ibirahuri, bafise inanga z'Imana.» kandi baririmba «indirimbo ya Mose» n'indirimbo wa mwagazi w'intama. Ivyahishuwe 15:2,3.

Umukiza yaserutse imbere ya Yohana mu ngereranyo «y'Intambwe yo mu muryango wa Yuda» n'iyo «Umwagazi w'intama asa n'uwishwe.» Ivyahishuwe 5:5, 6.Izo ngereranyo zerekana ubushobozi ntangere bufatanye n'urukundo rwitangako ikimazi. Iyo Ntambwe yo mu muryango wa Yuda, iteye ubwoba ku bahakana ubimtu bwayo, izoba umwagazi w'intama w'Imana ku bagamburuka kandi bakayoboka. Inkingi y'umuriro itera ubwoba kandi yuzuye uburake ku bahonyanga ivyagezwe vy'Imana ni ikimenyetso c'umuco n'ikigongwe n'ukubohorwa ku bitondeye amabwirizwa yayo. Ukuboko gukomeye kwo kurimbura abagumutsi kuzoba ukuboko gukomeye kwo gukiza abayoboke. Umuntu wese w'umwizigirwa azokizwa. «Azotuma abamarayika biwe n'ijwi

rirenga ry'inzamba, bakoranye abatoranijwe biwe, bave mu birere bine, guhera iyo ijuru ritangurira kugeza iyo riherera.» Matayo 24:31.

Ubagereranije n'imiliyoni y'abantu bari mw'isi, abantu b'Imana bazoba, nk'uko bamye baba, ubusho buto; ariko nibahagararira ukuri nk'uko guhishuriwe mw'ijambo ryayo, Imana izobabera ubuhungiro. Bahagarara mu si y'inkinzo y'Iyishobora vyose. Imana ni yo Nyamwinshi. Igihe ijwi ry'inzamba ya nyuma rizokwinjira mw'ibohero ry'abapfuye, kandi abagororotsi bakazuka n'akamo k'intsinzi, basemerera, «Wa rupfu we, uruboyi rwawe ruri hehe? Wa rupfu we, intsinzi yawe iri hehe?» (1 Ab'i Korinto 15 :55.)-bagahagararana n'Imana, na Kristo, n'abamarayika, hamwe n'abayoboke n'abanyakuri bo mu myaka yose, abana b'Imana ntibazoba ari umugabane nyamwinshi.

Abigishwa b'ukuri ba Kristo bamukurikira mu ngorane nyinshi, bakihanganira ukwiyanka kandi bagaca mu bibaca intege bibabaje; ariko ibi bibigisha ububi n'ibara vy'icaha, n'ukukiraba nk'igisesema. Basangira imibabaro na Kristo, bagenewe kuzosangira nawe ubwiza bwiwe. Muri iryo yerekwa ryera uwo muvugishwa n'Imana yabonye intsinzi ya nyuma y'ishengero ry'amasigarira. Yandika [310]
ati: «Mbona igisa n'ikiyaga c'ibirahuri kivanze n'umuriro: mbona n'abatabarutse banesheje... bahagaze kuri ico kiyaga c'ibirahuri, bafise inanga z'Imana. Baririmba indirimbo ya Mose umusavyi w'Imana, n indirimbo ya wa Mwagazi w intama, bavuga bati, Ibikorwa vyawe birahambaye kandi biratangaza, Mwami Mana ushobora vyose; inzira zawe ni izigororoka n'ukuri, Mukama w'amahanga.» Ivyahishuwe 15:2, 3. «Kandi mbona Umwagazi w'Intama, ahagaze ku musozi Siyoni, ahagararanye n'abantu ibihumbi ijana na mirongo ine na bine, bafise izina rya Se ryanditswe mu ruhanga rwabo.» Ivyahishuwe 14:1. Muri iyi si ivyiyumviro vyabo babihebeye Imana; bamukoreye bakoresheje ubwenge n'umutima wabo; none ubu ashobora gushira izina ryiwe «mu ruhanga rwabo.» «Kandi bazoba abami ibihe bitazoshira.» Ivyahishuwe 22:5. Ntibinjira kandi basohoka» nk'abasegerereza ikibanza. Bari mu gitigiri ca ba bandi Kristo abarira ngo, «Nimuze, abo Data yahezagiye, muragwe ubwami bwababateguriwe, uhereye ku kuremwa kw'isi.» Abaha ikaze nk'abana biwe, avuga ati, «Nimwinjire mu munezero wa shobuja.» Matayo 25:34, 21. «Abo ni bo bakurikira wa Mwagazi aho aja hose.

Abo bacunguwe mu bantu, kugira ngo babe umushuzo ku Mana no kuri wa Mwagazi.» Ivyahishuwe 14:4. Ivyo Uwuvugishwa yeretswe biberekana nk'abahagaze ku Musozi Siyoni, bakenyeye ngo bakore igikorwa cera, bambaye umwambaro wera, ari bwo bugororotsi bw'abera. Ariko abakurikira Umwagazi w'Intama mw'ijuru bategerezwa kuba baramukurikiye mw'isi, batabaye abanebwe canke ba sindabibazwa, ahubwo mu bwizigirwa, urukundo, biteguye kwumvira, nk'uko ubusho bukurikira umwungere. «Numva ijwi ryari rimeze nk'iry'abacuraranzi bacuraranga inanga zabo:Baririmba indirimbo nsha imbere ya ya ntebe y'ubwami: . . .kandi nta muntu yashoboye kwiga iyo ndirimbo Atari bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine, bacunguwe ngo bakurwe mw'isi. . . . Mu kanwa kabo ntihabonetsemwo ikinyoma: nta gasembwa bagira imbere y'intebe y'ubwami y'Imana.» Imirongo 2-5.

«Mbona umurwa wera, Yerusalemu musha, wururuka uva mw'ijuru ku Mana, witeguwe nk'umugeni asharizwa umugabo wiwe.» «Ugukayangana kwawo gusa n'ukw'ibuye ry'akabuyenge ry'igiciro kinini cane, nk'akabuyenge kitwa yasipi, kabonerana nk'icirore; izigujwe n'urugo runini rurerure rufise ibirimba cumi na bibiri, no mu birimba hariho abamarayika cumi na babiri, kandi hari amazina yanditsweko, ni yo y'imiryango cumi n'ibiri y'Abisirayeli.» «Kandi ibirimba, uko ari icumi na bibiri, vyari imaragarita cumi na zibiri: ikirimba kimwe cubakishijwe imaragarita imwe, bityo bityo: irango rya wa murwa ni izahabu nziza, isa n'ibirahuri bibonerana. Kandi sinabonye urusengero kuri wo, kuko Umwami Imana ishob-
[311] ora vyose na wa Mwagazi ari bo rusengero rwawo.» Ivyahishuwe 2.1:2, 11, 12, 21, 22. «Nta muvumo uzoba ukiriho: intebe y'Imana na wa Mwagazi izoba muri wa murwa, abagurano bayo bazokwama bashashe, bazoraba mu nyonga hayo, izina ryayo rizokwandikwa mu ruhanga rwabo. Nta joro rizoba rikiriho, kandi ntibazorinda kubonesherezwa n'itara canke kwakirwa n'izuba, kuko Umwami Imana ari yo izobakira.» Ivyahishuwe 22:3-5. «Anyereka uruzi rw'amazi y'ubugingo, rubonerana nk'icirore, ruva ku ntebe y'Imana na wa Mwagazi. Hagati y'irango rya wa murwa, hakurya no hakimo y'urwo ruzi hariho igiti c'ubugingo, cera icumi na kabiri mu mwaka, kikera rimwe- rimwe uko ukwezi gutashe: kandi ibibabi vyaco vyari ivyo kuvura amahanga.» «Hahirwa abitondera ivyagezwe vyiwe, ku-

gira ngo babone kwegera ca giti c'ubugingo, kandi bace mu kirimba bashike kuri wa murwa.» Imirongo 1, 2,14.

«Numva ijwi rirenga, rivuye mw'ijuru rivuga, riti:» Ehe ihema ry'Imana riri kumwe n'abantu, kandi izogerera muri bo, Kandi bazoba abantu bayo, kandi Imana ubwayo izobana na bo, izoba Imana yabo.» Ivyahishuwe 21:3.

## Ikigabane ca 58: Ishengero Ryatsinze

Ibinjana birenga cumi n'umunani vyararenganye kuva intumwa ziruhutse ibikorwa vyazo, ariko inkuru y'ibikorwa vyazo n'ukwitanga kwazo ku bwa Kristo kiracari mu bigize ubutunzi buhambaye bw'ishengero. Iyi nkuru, yanditswe mu burongozi bwa Mpwemu Yera, yabitswe ngo ihimirize abigishwa ba Kristo bo mu bihe vyose kwongereza ubwira n'umwete mu gikorwa c'Umukiza. Igikorwa Kristo yahaye abigishwa, barakiranguye. Ubwo izo ntumwa z'umusaraba batera imbera mukuvuga ubutumwa bwiza, ubwiza bw'Imana bwahishuwe mu buryo umwana w'umuntu atigeze abona. Ku bwo gukorana na Mpwemu w'Imana, intumwa yakoze igikorwa canyigangije isi. Mu gihe c'urunganwe rumwe gusa,ubutumwa bwashikiriye amahanga yose. Ivyamwa bitangaje vyaherekeje igikorwa c'izo ntumwa zatoranijwe za Kristo. Mu ntango y'igikorwa cabo, bamwe muri bo ntibari barize amashure, ariko ukwitanga kwabo ku bwo igikorwa c'Umwigisha wabo ntikwagira uko kungana, kandi ku bwo inyigisho ziwe baronse umwiteguro ku bwo igikorwa bajejwe. Ubuntu n'ukuri vyaba mu mitima yabo, bibashiramwo imigambi kandi bibategeka ivyo bakora. Ubuzima bwabo bwari buhishijwe hamwe na Kristo mu Mana, kandi bariyibagiye, bujujwe n'urukundo rutagira akagero.

Abigishwa bari abantu bari bazi kuvuga no gusenga mu kuri, abantu bashobora kwishimikiza ubushobozi bw'Inkomezi za Isir-
[312] ayeli. Ese ingene bahagaze neza ku ruhande rw'Imana, kandi bagashira icubahiro cabo ku ntebe yiwe y'ubwami! Yehova yari Imana yabo. Icubahiro cayo cari icubahiro cabo. Ukuri kwayo kwari ukuri kwabo. Icarwanya ubutumwa bwiza casa nk'igitema mu mitma yabo, kandi barwanira igikorwa ca Kristo n'inkomezi zabo zose. Bashobora gutwara ijambo ry'ubugingo kubera bari basizwe amavuta yo mw'ijuru. Bari biteze ibihambaye, kandi ku bw'ivyo bagerageza ibihambaye. Kristo yari yarabihishuriye, kandi kuri We ni ho barondera uburongozi. Ugutahura ukuri n'ubushobozi bwabo, gushikama mu ngorane vyari biringaniye

n'uguhuza kwabo n'ubugombe bw'Imana. Yesu Kristo, ubwenge n'ubushobozi bw'Imana, ni we yari ishimikiro mu majambo yabo yose bavuga. Izina ryiwe-rya zina rimwe gusa mu si y'ijuru abantu bahawe ngo bakirizwemwo-barishira hejuru. Ubwo bamamaza ubuziranenge bwa Kristo, Umukiza yazutse, amajambo yabo yakora ku mitima, kandi abagabo n'abagore barakira ubutumwa bwiza. Abantu benshi bari baratutse izina ry'Umukiza kandi bagakengera ububasha bwiwe, noneho batura ko ari abigishwa b'Uwabambwe.

Si mu bushobozi bwabo intumwa zaranguye igikorwa cazo, ariko ni mu bushobozi bw'Imana nzima. Igikorwa cabo nti cari coroshe. Ibikorwa vy'umushike vy'ishengero rya Kristo vyarimwo uburuhe n'akabonge kenshi. Mu bikorwa cabo abigishwa bahura na ntaryo n'ukubura vyose, kudodoberezwa, n'agahamo; ariko ntibaharuye ubuzima bwabo nk'ubw'agaciro kuri bo kandi bahimbarwa n'uko bahamagariwe kubabara ku bwa Kristo. Kugenda biguru ntege, kudafata ingingo, kugira intege nke mu ntumbero, nta kibanza vyagira mu twigoro twabo. Bari biteguye gutanga n'ugutangwa. Agatima kabo ko kuguma kw'ibanga kari muri bo katyoroye kandi gakuza ubuzima bwabo, kandi ubuntu bw'ijuru bwigaragaje mu ntsinzi bashitseko ku bwa Kristo. Mu bushobozi ntangere Imana yakoreye muri bo, ubutumwa bwiza bwahakuye intsinzi.

Ku mushinge Kristo ubwiwe yashinze, intumwa zubatseko ishengero ry'Imana. Mu Vyanditswe Vyera ingereranyo y'inyubako y' urusengero ikoreshwa kenshi ngo ishushanye iyubakwa ry'ishengero. Zekariya avuga Kristo nk'Ishami rizokwubaka urusengero rw'Uhoraho. Avuga ko abanyamahanga bazoterera agacumu k'ubumwe muri ico gikorwa: «Kandi abazoba bari kure bazoza bubake urusengero

rw'Uhoraho;» na Yesaya avuga ati, «Abanyamahanga bazokwubaka inzitiro zawe.» Zekariya 6 :12, 15; Yesaya 60:10. Petero yandika avuga ivy'urwo rusengero, yagize, ati «Nuko mumwegere, ari We buye rifise ubugingo, ryagawe n'abantu, ariko ku Mana ryatoranijwe, riri n'igiciro, mwubakwe nk'amabuye afise ubugingo, kugira ngo mube inzu yo mu buryo bw'impwemu, mugire ibango ry'ubuherezi ryera, ngo mutange ibimazi mu buryo bw'impwemu, bishimwa n'Imana ku bwa kristo.» lPetero 2:4,5. Mu kurondera [313]
Abayuda n'Abanyamahanga, intumwa zarakora, zizana amabuye yo kugereka ku mushinge. Mw'ikete ku bizera b'i Efeso, Paulo yavuze,

ati «Nuko ntimukiri abashitsi n'akavantara, ariko musangiye ubwoko n'abera, muri abo mu ngoro y'Imana; kuko mwubatswe ku mabuye y'itanguriro, ari yo ntumwa n'abavugishwa n'Imana, Kristo Yesu ari We buye rigumya imfuruka; muri We ingoro yose, yubatswe neza, irakura, ngo ibe urusengero rwera mu Mwami wacu: muri We namwe murubakanwa, kugira ngo muheshwe na Mpwemu kuba ingoro y'Imana.» Abanyefeso 2:19-22.

No ku Bakorinto yanditse ati: «Nk'uko nahawe ubuntu n'Imana, nashizeho itanguriro, nk'umwubakisha mukuru w'ubwenge, uwundi yubakako. Ariko umuntu wese ni yiyubare uko yubakako. Kuko irindi tanguriro ata muntu ashobora kurishiraho, atari iryashizweho, ni ryo Yesu Kristo. Ariko iryo tanguriro umuntu ni yaryubakishako izahabu, canke ifeza, canke amabuye y'igiciro kinini, canke ibiti, canke ubwatsi, canke ibishakashaka, igikorwa c'uwo wese kizoseruka: wa musi uzogiserura, kuko uzohishuranwa n'urnuriro, kandi igikorwa c'umuntu wese uwo muriro uzokigeza ico kirimwo.» 1 Ab'i Korinto 3:10-13.

Intumwa zubatse kw'itanguriro rishikamye, ku Gitandara ca Kera. Kuri iri tanguriro bazanye amabuye bahize mu mahanga yose. Abubatsi ntibubatse hatabaye intambamyi. Igikorwa cabo caremerejwe n'ingorane n'intambara z'abansi ba Kristo. Bahura n'amacakubiri, kuvugwa ukutari ko, n'ukwankwa n'abariko barubaka kw'itanguriro ry'ikinyoma. Benshi mu bakoze nk'abubatsi b'ishengero bashobora kugereranywa n'abubatsi b'uruzitiro mu gihe ca Nehemiya, bavugwa ngo: «Nuko abubaka uruzitiro n'abikorezi n'ababakorera, umuntu wese yakoresha ukuboko kumwe, ukundi gufashe ikirwanishwa ciwe.» Nehemiya 4:17.

Abami n'abatware, abaherezi n'abaganza, bagerageje gusenyura ingoro y'Imana. Ariko mu maso y'umunyororo, guhohoterwa, n'urupfu, abantu b'abizigirwa bateje imbere igikorwa; maze inyubako irakura, nziza kandi y'uburinganire bwiza. Rimwe na rimwe abakozi bahatswe guhumishwa amaso n'ibipfungu vy'ukwizera ibintazi vyari bibazungurutse. Rimwe na rimwe bahakwa kuneshwa n'agahahazo k'ababarwanya. Ariko bakomeje igikorwa n'ukwizera kudahungabana n'ubutwari ntangere. Umwe inyuma y'uwundi, abubatsi ba mbere bakubiswe ku buhomba n'ukuboko kw'umwansi. Stefano yicishijwe amabuye; Yakobo yicishijwe inkota; Paulo yaciwe umutwe; Petero yarabambwe; Yohana yarangajwe. Ariko ishengero

ryarakuze. Abakozi bashasha basubiye mu kibanza c'abapfuye, kandi ibuye inyuma y'irindi lyongewe ku nyubakwa. Uku ni ko buhoro buhoro ingoro y'ishengero ry'Imana yaduze.

Ibinjana vy'agahamo gakomeye vyakurikiye ishingwa ry'ishengero [314] rya Kristo, ariko ntihigeze habura abantu baharura ko igikorwa co kwubaka ingoro y'Imana gifise agaciro kuruta n'ubuzima. Ku bw'abo bantu handitswe ngo: «Abandi bageragereshwa gushinyagurirwa no gukubitwa ibimoko, mbere bashirwa mu ngoyi no mu mabohero: bicishijwe amabuye, bakerewemwo kubiri, barageragejwe, bicishijwe inkota, bayerera bambaye insato z'intama n'iz'impene, bari baburaniwe, bababazwa, bagiririwa nabi; (isi ntiyari ibabereye ko bayibamwo), bayerera mu bugaragwa no mu bisozi no mu masenga no mu vyobo.» Abaheburayo 11:36-38.

Umwansi w'ukugororoka nta co atakoze ngo ahagarike igikorwa cahawe abubatsi b'Uhoraho. Ariko Imana «ntiyigeze ibura abayishingira intahe.» Ivyakozwe 14:17. Abakozi barahagurutse barwanira ukuri kwari kwahawe abera ba mbere. Kahise kanditse ubutwari n'ubuhizi bw'abo bantu. Nk'uko vyagendeye intumwa, bamwe baguye ku kivi, eriko inyubakwa y'ingoro y'Imana irabandanya. Abakozi barishwe, ariko igikorwa kiratera imbere. Abawaludensi, Yohana Wycliffe, Huss na Jerome, Martin Luther na Zwingli, Karanimeri, Latimer, na Kinox, Abahugeno, Yohana na Charles Wesley, n'isinzi ry'abandi bazanye ku mushinge ibikoresho bizokwamaho ibihe bidashira. No mu misi yakurikiye, abagerageje gukwiragiza ijambo ry'Imana, n'abo ku bwo igikorwa bakoze mu turere tw'abapagani bateguriye inzira iyamamazwa ry'ubutumwa buhambaye bwa nyuma-na bo nyene barafashije kuduza inyubakwa. Naho imyaka yashize kuva igihe c'intumwa, iyubakwa ry'urusengero rw'Imana ntiryigeze rihagarara. Dushobora kuraba inyuma mu binjana vyashize kandi tukabona amabuye mazima akayangana nk'amabuye y'agaciro y'umuco hagati y'umwiza w'ikinyoma n'ukwizera ibintazi. Mu bihe vyose aya mabuye y'agaciro azokwongereza ugukayangana, ashingira intahe ubushobozi bw'ukuri kw'Imana. Urumuri rw'ayo mabuye anowe ruhishura igihushane kiri hagati y'umuco n'umwiza, hagati y'izahabu y'ukuri n'umwanda w'ikinyoma.

Paulo n'intumwa, n'abagororotsi bose babayeho kuva ico gihe, bakoze uruhara rwabo mu kwubaka iyo ngoro. Ariko inyubakwa

ntiruzura. Twebwe turiho muri uru ruvyaro, turafise igikorwa co gukora, uruhara rwacu. Dutegerezwa kuzana kw'itanguriro ibikoresho bizorinda igipimo c'umuriro-izahabu, ifeza, n'amabuye y'agaciro, «bimeze nk'inkingi zihinguwe nk'uko bashariza ingoro.» Zaburi 144:12. Kuri abo bubakira Imana batyo, Paulo avuga aya majambo yo kubaremesha n'ukubakebura: «Igikorwa c'umuntu, ico yubatse kuri iryo tanguriro, ni carama, azohabwa ingero; igikorwa c'umuntu ni casha, azobura ingero, yamara ubwiwe azokira; ariko nk'uwokowe mu muriro.» 1 Ab'i Korinto 3:14, 15. Umukristo yigisha ijambo ry'ubugingo mu bwizigirwa, ayobora
[315] abagabo n'abagore mu nzira y'ubugororotsi n'amahoro, ariko azana kw'itanguriro ibikoresho bizorama, kandi mu bwami bw'Imana azohabwa icubahiro nk'umwubatsi w'ubwenge. Ku vyerekeye intumwa handitswe ngo, «Abo bavayo, bigisha hose, Umwami Yesu akorana na bo, ijambo ryiwe arishingishiriza intahe ibimenyesto birikurikira.» Mariko 16:20. Uko Kristo yarungika abigishwa biwe, ni ko n'uyu musi arungika abanywanyi b'ishengero.

Bwa bushobozi intumwa zari zifise ni ubwabo. Ni bagira Imana inkomezi zabo, azokorana na bo, kandi ntibazokorera ubusa. Nibatahure ko igikorwa barimwo ari igikorwa Uhoraho yashizeko ikidodo ciwe. Imana yabwiye Yeremiya iti, «Ntaco uvuga, ngo ndacari muto; kuko uwo nzogutumako wese ari we uzojako, kandi ico nzokubarira cose ari co ukwiye kuvuga. Ntuze ugire ubwoba ku bwabo, kuko nzoba ndi kumwe nawe ngo nkurokore.» Uhoraho araheza aramvura ukuboko akora ku munwa w'umusuku wiwe, avuga ati «Ehe nshize amajambo yanje mu kanwa kawe.» Yeremiya 1:7-9. Kandi adusaba kugenda kuvuga amajambo aduhaye, tukumva ko ukuboko kwiwe kwera gukoze ku minwa yacu. Kristo yahaye ishengero igikorwa cera. Umukristo wese ategerezwa kuba umuringoti Imana inyuramwo mu gushikanira abo mw'isi ubutimzi bw'ubuntu bwayo, ubutunzi bw'intabonwa bwa Kristo. Nta kintu Umukiza yifuza cane nk'abantu b'ibikoresho bazokwereka abari mw'isi Mpwemu wiwe na kamere yiwe. Nta kintu isi ikeneye cane nk'ukubona mu bantu urukundo rw'Umukiza. Ijuru ryose rirarindiriye abagabo n'abagore Imana ishobora guhishuriramwo ubushobozi bw'Ubukristo.

Ishengero ni igikoresho c'Imana co kwamamaza ukuri, bashobojwe na Yo gukora igikorwa c'umwihariko; kandi ni ryayiyoboka,

rikitondera ivyagezwe vyayo vyose, rizokwama ryuzuye ubunengesere bw'ubuntu bwayo. Ni ryaba iryizigirwa mu gikorwa caryo, ni ryahesha icubahiro Uhoraho Imana y'Isirayeh, nta bushobozi bushobora kurihangara. Umwete ku bwo Imana n'igikorwa cayo wasunika abigishwa gutwara ubutumwa bwiza n'ubushobozi buhambaye. Umwete nk'uwo ntiwokwaka mu mitima yacu tugafata ingingo yo kuvuga inkuru y'urukundo rwaducunguye, rwa kristo, kandi Kristo yabambwe? Ni amahirwe ku Mukristo wese, atari ukurindira gusa ukuza kw'Umukiza, ahubwo kwihutisha ukuza kwiwe.

Ishengero ni ryambara ikanzu y'ukugororoka kwa Kristo, rikavavanura n'isi burundu, imbere yaryo hari umutwenzi w'umusi ukayangana kandi w'ubwiza. Isezerano ry'Imana kuri ryo rizoshikama ibihe bidashira. Azorigira akaroruhore ibihe bidashira, umunezero w'uruvyaro rwinshi. Ukuri, naho abantu bagukengera kandi bakagutera umugongo, kuzotsinda. Naho rimwe na rimwe bisa n'uko guteba, iterambere ryakwo ntiryigeze riburabuzwa. Iyo ubutumwa bw'Imana buhuye n'intambamyi, iyo ntambamyi ibwongereza inkomezi kugira ngo buroranirwe kuruta. Bwambaye [316]
inkomezi z'Imana, buzotobekeranya imitego ikomeye cane kandi butahane intsinzi ku ntambamyi imwe imwe yose. Ni iki cashigikiye Umwana w'Imana mu buzima bwiwe bw'ibikorwa biruhije n'ukwitanga? Yabonye ivyamwa vy'igikorwa c'umutima wiwe, maze aranyurwa. Yaravye mu bihe bidashira, abona umunezero w'abo, biciye mu gucishwa bugufi kwiwe baronse ikigongwe n'ubugingo budashira. Ugutwi kwiwe kwumvise akamo k'abacunguwe. Yumvise abacunguwe baririmba indirimbo ya Mose n'indirimbo y'Umwagazi w'Intama. Dushobora kubona kazoza, imihezagiro y'ijuru. Muri Bibiliya hahishuwe kazoza k'ubwiza, ibintu vyakozwe n'ikiganza c'Imana, kandi ivyo n'ivy'agaciro kw'ishengero ryayo. Ku bwo kwizera dushobora guhagarara kw'irembo ry'igisagara gihoraho, tukumva ikaze ry'ubugwaneza rihabwa abo, mu buzima bakoranye na Kristo, bakabona ko ari iteka ridasanzwe kubabara ku bwiwe. Igihe ya majambo avugwa, «Ni muze, abo Data yahezagiye,» Baterera ibitsibo vyabo ku birenge vy'Umukiza, bavuga n'ijwi rirenga ngo, «Umwagazi yishwe abereye guhabwa ububasha n'ubutunzi n'ubwenge n'ubushobozi n'icubahiro no guhimbazwa n'umugisha. . . . Iyivyagiye ku ntebe bo

n'Umwagazi w'Intama, umugisha ube uwabo n'icubahiro no guhimbazwa n'ububasha, ibihe bitazoshira.» Matayo 25:34; Ivyahishuwe 5:12,13.

Hariya abacunguwe baramutsa ababayoboye ku Mukiza, kandi bose bashira hamwe bahimbaza uwapfuye kugira ngo abantu baronke ubugingo buringaniye n'ubw'Imana. Intambara irarangiye. Imibabaro n'indyane biraheze. Indirimbo z'intsinzi zuzuye ijuru ryose ubwo abacunguwe bigina n' umunezero, arabereye, araberye, Umwagazi yishwe, kandi akaba ari muzima, umuhizi yatahanye intsinzi. «Hanyuma y'ivyo mbona ishengero ryinshi, ata woshobora kuriharura, bo mu mahanga yose n'imiryango yose n'amoko yose n'indimi zose, bahagaze imbere y'iyo ntebe n'imbere y'Umwagazi w'Intama, bambaye imvune zera, bari n'amashami y'ibigazi mu minwe; basemerera ri'ijwi rirenga, bati Agakiza ni ak'Imana yacu ivyagiye kuri irya ntebe n'ak'Umwagazi w'Intama.» Ivyahishuwe 7 :9,10.

«Aba ni abavuye muri wa mubabaro mwinshi, kandi bamesuye imvune zabo bazezesha amaraso ya wa Mwagazi. Ni co gituma baba imbere y'intebe y'Imana, bakayikorera mu rusengero rwayo ku murango no mw'ijoro: kandi iyivyagiye kuri irya ntebe izosanza ihema ryayo hejuru yabo. Ntibazoba bakigira inzara ukundi, kandi ntibazoba bakigira inyota ukundi, kandi izuba ntirizobarabika canke indugumba yose, kuko wa mwagazi ari hagati ahahanganye n'iyo ntebe, azobaragira, kandi azobashora ku masoko y'amazi y'ubugingo: kandi Imana izobahanagura amosozi yose ku maso yabo.» «Kandi urupfu ntiruzoba rukiriho, kandi amaborogo no gutaka n'uburibwe ntibizoba bikiriho: kuko ivya mbere bishize.» Ivyahishuwe 7:14-17; 21:4.